# New Testament



Kirundi Language

# Kirundi - Bible - New Testament


| | |
|---|---|
| Matayo | 3 |
| Mariko | 60 |
| Luka | 96 |
| Yohana | 158 |
| Igitabo C' Ivyakozwe N'intumwa | 204 |
| Abaroma | 263 |
| Korinto Rya Mbere | 288 |
| Korinto Rya Kabiri | 313 |
| Galatiya | 329 |
| Abanyefeso | 338 |
| Filipi | 347 |
| Kolosayi | 353 |
| Tesalonike Rya Mbere | 359 |
| Tesalonike Rya Kabiri | 365 |
| Timoteyo Rya Mbere | 368 |
| Timoteyo Rya Kabiri | 375 |
| Tito | 380 |
| Filemoni | 383 |
| Abaheburayo | 385 |
| Yakobo | 403 |
| Petero Rya Mbere | 410 |
| Petero Rya Kabiri | 417 |
| Yohana Rya Mbere | 421 |
| Yohana Rya Kabiri | 427 |
| Yohana Rya Gatatu | 428 |
| Yuda | 429 |
| Intangamarara | 431 |


© 2007 Bible Society of Burundi.

# Kirundi - Bible - New Testament

## Matayo

### Matayo 1

[1]Igitabo kidondora ukuvuka kwa Yesu Kristo, umwana wa Dawidi. Dawidi ni umwana wa Aburahamu.

[2]Aburahamu yavyaye Isaka. Isaka yavyaye Yakobo. Yakobo yavyaye Yuda n'abandi bavukana.

[3]Yuda yavyaye Peresi na Zera kuri Tamari. Peresi yavyaye Hesironi. Hesironi yavyaye Ramu.

[4]Ramu yavyaye Aminadabu. Aminadabu yavyaye Nahasoni. Nahasoni yavyaye Salumoni.

[5]Salumoni yavyaye Bowazi kuri Rahabu. Bowazi yavyaye Obedi kuri Rusi. Obedi yavyaye Isayi.

[6]Isayi yavyaye umwami Dawidi. Dawidi yavyaye Salomo kuri muka Uriya.

[7]Salomo yavyaye Rehobowamu. Rehobowamu yavyaye Abiya. Abiya yavyaye Asa.

[8]Asa yavyaye Yehoshafati. Yehoshafati yavyaye Yoramu. Yoramu yavyaye Uziya.

[9]Uziya yavyaye Yotamu. Yotamu yavyaye Ahazi. Ahazi yavyaye Hezekiya.

[10]Hezekiya yavyaye Manase. Manase yavyaye Amoni. Amoni yavyaye Yosiya.

[11]Yosiya yavyaye Yekoniya n'abandi bavukana, mu gihe co kujanwa mu buja i Babuloni.

[12]Kuva mu gihe co kujanwa mu buja i Babuloni Yekoniya yavyaye Shalutiyeli, Shalutiyeli yavyaye Zerubabeli.

[13]Zerubabeli yavyaye Abihudi. Abihudi yavyaye Eliyakimu. Eliyakimu yavyaye Azori.

[14]Azori yavyaye Sadoki. Sadoki yavyaye Akimu. Akimu yavyaye Elihudi.

[15]Elihudi yavyaye Eleyazari. Eleyazari yavyaye Matani. Matani yavyaye Yakobo.

[16]Yakobo yavyaye Yosefu, umugabo wa Mariya nyina wa Yesu yitwa Kristo.

[17]Nuko ba sekuruza bose guhera kuri Aburahamu gushitsa kuri Dawidi n'icumi na bane, kandi guhera kuri Dawidi gushitsa ku gihe co kujanwa mu buja i Babuloni ni icumi na bane, kandi guhera ku gihe co kujanwa mu buja i Babuloni gushitsa kuri Kristo ni icumi na bane nyene.

© 2007 Bible Society of Burundi.

18Ukuvuka kwa Yesu Kristo kwabaye gutya: Mariya, nyina wiwe yari, akowe na Yosefu ataramurongora bamubona afise inda yavuye kuri Mpwemu Yera.

19Ariko umugabo wiwe Yosefu, kuko ari umugororotsi, kandi kuko atagomvye kumutetereza, yiyumvira kumubengera mu mpisho.

20Akivyiyumvira, umumarayika w' Umwami Imana amwiyerekera mu nzozi, aramubarira ati: "Yosefu, mwana wa Dawidi, ntutinye kurongora Mariya umugeni wawe, kuko atwaye inda ya Mpwemu Yera.

21Azovyara umwana w'umuhungu, nawe uzomwite YESU, kuko ari we azokiza abantu biwe ivyaha vyabo."

22Ivyo vyose vyabaye bityo ngo ivyo Umwami Imana yavugiye mu kanwa k'uwavugishwa na we biboneke,

23ngo raba, inkumi izotwara inda, ivyare umwana w'umuhungu, Bazomwita Imanuweli; risobanurwa ngo Imana iri kumwe natwe.

24Yosefu yikanguye aravyuka, agira nk'uko umumarayika w'Umwami Imana yamubariye, arongora umugeni wiwe.

25Kandi ntiyigera amwegera gushitsa aho yavyariye umwana w'umuhungu; araheza amwita YESU.

## Matayo 2

1Yesu amaze kuvukira i Betelehemu mu gihugu c'Ubuyuda ku butware bw'umwami Herode, haza abanyabwenge bavuye mu buseruko, baja i Yerusalemu,

2barabaza bati: "Umwami w'Abayuda yavutse ari hehe? Kuko twabonye inyenyeri yiwe?" "ri mu buseruko, none tukaba tuzanywe no kumushengerera."

3Umwami Herode avyumvise, ahagarikana umutima n'abo i Yerusalemu bose.

4Akoranya abakuru b'abaherezi n'abahinga b'ivyanditswe bose bo muri ubwo bwoko, arababaza ati: "Kristo azovukira hehe?"

5Bati: "Ni i Betelehemu mu gihugu c'i Yudaya, ni ko vyanditswe n'umuntu yavugishwa n'Imana,

6Kandi wewe Betelehemu mu ntara y'Ubuyuda, Nturi mutoya mu baganwa b'Ubuyuda, Kuko kuri wewe hazova uwuganza, Ni we azoragira abantu banje b'Abisirayeli."

7Buno Herode ahamagaza ba bahinga mu mpisho, abasiguza igihe iyo nyenyeri yabonekeye.

8Abatuma i Betelehemu ati: "Nimugende, mubaze mushirutse umwete ivyo uwo mwana. Ni mwamubona muce muza kumbarira, ngo nanje ngende kumushengerera." "

© 2007 Bible Society of Burundi.

9Na bo bumvise iryo umwami, baragenda. Maze iyo nyenyeri babonye mu buseruko irabarongora, ibashikana hejuru y'aho uwo mwana ari, ihagararaho.

10Babonye iyo nyenyeri banezerwa akaneza kenshi cane.

11Bashitse mu nzu babona uwo mwana na Mariya nyina wiwe; bikubita hasi, baramupfukamira, barumura ibiseke vyabo, bamushikanira amashikanwa, izahabu, imibavu n'isenga.

12Babwiriwe n'Imana mu nzozi ngo ntibasubire guca kwa Herode, baca mu yindi nzira, bisubirira mu gihugu c'i wabo.

13Bamaze kugenda, umumarayika w'Umwami Imana yiyerekera Yosefu mu nzozi, aramubwira ati:" "Vyuka, ujane umwana na nyina, uhungire mu Misiri, ugumeyo gushitsa aho nzokubaririra, kuko Herode agira arondere umwana ngo amwice.”

14Ahenga mw'ijoro aravyuka, ajana umwana na nyina, aja mu Misiri,

15aguma yo gushitsa Herode amaze gupfa, ngo ivyo Umwami Imana yavugiye mu wavugishwa na we bishike, ngo Nahamagaye umwana wanje ngo ave mu Misiri.

16Maze Herode abonye ko yahenzwe n'abo banyabwenge, ararakara cane. Atuma kugeseza abana b'abahungu bose b'i Betelehemu no mu misozi yose ihakikije, abamaze imyaka ibiri n'abatarayimara, yagerereje igihe yasigurije abanyabwenge.

17Ni ho ivyavuzwe na Yeremiya yavugishwa n'Imana vyashikiye,

18ngo induru yumvikana i Rama, Amarira n'amaborogo menshi; Rakeli aririra abana biwe, Yanka kwirurwa, kuko batakiriho.

19Herode amaze gupfa, umumarayika w'Umwami Imana yiyerekera Yosefu mu nzozi ari mu Misiri,

20aramubwira ati: "Vyuka, ujane umwana na nyina, uje mu gihugu c'i Bwisirayeli, kuko abarondera kwica umwana bapfuye.”

21Avyutse, ajana umwana na nyina, aragenda, ashika mu gihugu c'i Bwisirayeli.

22Ariko yumvise yuko Arukelayo yimitswe i Yudaya, asubiye ku butware bwa se Herode, atinya kujayo. Abwiriwe mu nzozi, aja mu bihugu vy'i Galilaya.

23Ashitseyo, agerera mu gisagara citwa Nazareti, ngo ivyavuzwe n'abavugishwa n'Imana bishike, ngo azokwitwa Umunyanazareti.

## Matayo 3

1Muri iyo misi haza Yohana Umubatizi, yigishiriza mu bugaragwa bw'i Yudaya

2ati: "Mwihane, kuko ubwami bwo mw'ijuru buri hafi.”

3Uwo ni we yavuzwe na Yesaya yavugishwa n' Imana ati: "Ijwi ry'uwusemererera mu bugaragwa Ngo ni mutegure inzira y' Uhoraho, Mugorore izagutse ziwe.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

4Uwo Yohana, imyambaro yiwe yari iyo ubwoya bw'ingamiya, yayikenyeza umukanda w'urusato mu rukenyerero; indya ziwe zari inzige n'ubuki bwo mw'ishamba.

5Maze abo i Yerusalemu n'abo i Yudaya bose n'igihugu giherereye kuri Yorodani cose, bava i wabo baza kuri we,

6babatizwa na we mu ruzi Yorodani, batura ivyaha vyabo.

7Abonye benshi bo mu Bafarisayo no mu Basadukayo bazanywe no kugira ngo ababatize, arababaza ati: "Mwa bana b'inzoka mwe, ni nde yababuriye ngo muhunge ishavu rizoza?"

8Nuko ni mukore ibiberekana ko mwihanye koko.

9Ntimwiyumvire mu mitima ngo mufise Aburahamu, ko sogokuruza. Ndababwira yuko aya mabuye Imana ishobora kuyakuramwo abana ba Aburahamu.

10Ariko incabiti itumberejwe ku bitsina vy'ibiti; nuko rero igiti cose kitama ivyiza kiracibwa, kigatererwa mu muriro.

11Ni ukuri jeho ndababatiza mu mazi ngo mwihane; ariko uwuzoza hanyuma yanje andusha ubushobozi, ntibimbereye no kumutwaza ibirato. Uwo azobabatiza muri Mpwemu Yera no mu muriro.

12Urutaro rwiwe ruri mu kuboko kwiwe, kandi azokubura imbuga yiwe neza, yimburire ingano ziwe mu kigega, maze umuguruka awuturire mu muriro utazima.

13Ico gihe Yesu ava i Galilaya, aja kuri Yorodani aje kuri Yohana, azanywe no kubatizwa na we.

14Ariko Yohana agomba kumwankira ati: "Ko ari jewe nkwiye kubatizwa nawe; none unjeko?"

15Yesu aramwishura ati: "Bikunde kuko ari vyo bidukwiye, ngo dushitse ukugororoka kwose." Buno aramukundira.

16Yesu amaze kubatizwa, aca ava mu mazi; maze ijuru riruguruka, abona Mpwemu w'Imana, amanuka asa n'inuma, amugwako.

17Buno rero ijwi riva mw'ijuru riti: "Uwu ni we Mwana wanje nkunda akampimbara."

## Matayo 4

1Buno Yesu aduganwa na Mpwemu mu bugaragwa ngo ageragezwe n'Umwansi Satani.

2Amaze imisi mirongo ine n'amajoro mirongo ine yisonzesheje, abona gusonza.

3Umugeragezi aza kuri we ati: "Ni waba uri Umwana w' Imana, bwira aya mabuye acike imitsima."

© 2007 Bible Society of Burundi.

4Aramwishura ati: "Vyanditswe ngo umuntu ntatungwa n'umutsima gusa, ariko atungwa n'ijambo ryose riva mu kanwa k'Imana."

5Buno Umwansi Satani amujana mu gisagara cera, amuhagarika ku gatwe k'urusengero,

6aramubwira ati: "Ni waba uri Umwana w'Imana, ikororere hasi, kuko vyanditswe, ngo azokuragiza abamarayika biwe, Na bo bazokuramira mu maboko yabo, Ngo kumbure ntutsitare kw'ibuye."

7Yesu aramubwira ati: "Vyongeye haranditswe, ngo Ntukagerageze Uhoraho, Imana yawe."

8Umwansi Satani yongera kumujana ku musozi uhagaze cane, amwereka ubwami bwose bwo mw'isi n'ubwiza bwabwo

9ati: "Ivyo vyose ndabiguha, ni wampfukamira, ukansenga."

10Buno Yesu aramubwira ati: "Mvako, Satani, kuko vyanditswe, ngo Uhoraho, Imana yawe, ube ari yo usenga, kandi ube ari yo usaba yonyene." "

11Maze Umwansi Satani aramureka, kandi abamarayika baraza, baramukorera.

12Yumvise ko Yohana yashizwe mw'ibohero, aja i Galilaya.

13Yimuka i Nazareti, aja kuba i Kaperinawumu hafi y'ikiyaga mu rubibe rwa Zebuloni na Nafutali,

14ngo ivyanditswe na Yesaya yavugishwa n'Imana bishike,

15ngo igihugu ca Zebuloni n'igihugu ca Nafutali, Aherekeye ku kiyaga, hakurya ya Yorodani, I Galilaya mu gihugu c'abanyamahanga,

16Abantu bari bicaye mu mwiza, Babonye umuco mwinshi, Kandi abari bicaye mu gihugu c'urupfu no mu gitutu carwo, Umuco urasiye kuri bo.

17Guhera ubwo, Yesu atangura kwigisha ati:" "Mwihane, kuko ubwami bwo mw'ijuru buri hafi."

18Aciye i ruhande y'ikiyaga c'i Galilaya, abona abavukana babiri b'abarovyi, Simoni yitwa Petero na Andereya mwene nyina, bariko baraterera urusenga mu kiyaga.

19Arababwira ati: "Ni munkurikire, nzobagira abaroba abantu." "

20Baca bareka insenga, baramukurikira.

21Yigiye imbere yaho, abona abandi bavukana babiri, Yakobo umwana wa Zebedayo na mwene nyina Yohana, bari kumwe na se Zebedayo mu bwato, bariko barasanura insenga zabo, arabahamagara.

22Baca bareka ubwato na se, baramukurikira.

23Yesu agendagenda i Galilaya hose, yigisha mu nsengero z'Abayuda, ababwira ubutumwa bwiza bw'ubwami, akiza abantu indwara n'ubumuga vy'uburyo bwose.

© 2007 Bible Society of Burundi.

[24]Inkuru yiwe ikwira i Siriya hose, bamuzanira abarwaye bose bafashwe n'indwara zitandukanye n'ibibasesereje, n'abinjiwemwo n'abadayimoni, n'abarwaye intandara, n'ibimuga; arabakiza.

[25]Kandi ishengero ryinshi riramukurikira bavuye i Galilaya, i Dekapoli, i Yerusalemu n'i Yudaya no hakurya ya Yorodani."

## Matayo 5

[1]Abonye iryo shengero, aduga umusozi. Amaze kwicara, abigishwa biwe baramwegera.

[2]Aherako aravuga, arabigisha

[3]ati: "Harahiriwe aboro mu mitima yabo, kuko ubwami bwo mw'ijuru ari ubwabo."

[4]Harahiriwe abatuntuye, kuko ari bo bazokwirurwa.

[5]Harahiriwe abatekereza, kuko ari bo bazoragwa isi.

[6]Harahiriwe abafise inzara n'inyota vyo kugororoka, kuko ari bo bazohazwa.

[7]Harahiriwe abagira imbabazi, kuko ari bo bazozigiririrwa.

[8]Harahiriwe abafise imitima itanduye, kuko ari bo bazobona Imana.

[9]Harahiriwe ababanguranya, kuko ari bo bazokwitwa abana b'Imana.

[10]Harahiriwe abahamwa bahorwa ukugororoka, kuko ubwami bwo mw'ijuru ari bwabo.

[11]Namwe muzoba muhiriwe aho bazobatuka bakabahama bakabarementaniriza ibibi vyose babampoye.

[12]Munezerwe, muhimbarwe, kuko impera zanyu ari nyinshi mw'ijuru; kuko ari ko bahama abavugishwa n'Imana ba mbere.

[13]Muri umunyu w'isi. Ariko umunyu, iyo ushize uburyohe, uba ukiryoshwa ni igiki? Nta co uba ukimaze atari ugutabwa hanze ugahonyangwa n'abantu.

[14]Muri umuco w'isi. Igisagara cubatswe mw'itaba ry'umusozi ntigishobora guhishwa.

[15]Nta bodomeka itara ngo baryubikeko igiseke, ariko barishira ku gitereko caryo, ngo ribonesshereze abari mu nzu bose.

[16]Abe ari ko umuco wanyu ubonesha imbere y'abantu, ngo babone ibikorwa vyanyu vyiza, bashemagize So wo mw'ijuru.

[17]Ntimugire ngo naje gusenyura ivyagezwe canke amajambo y' abavugishwa n'Imana. Sinaje kubisenyura, naje kubishitsa.

[18]Ndababwire ukuri, ijuru n'isi bikiriho nta n'akadome na kamwe canke n'akazatsa bizova ku vyagezwe, gushitsa aho vyose bizoheraherezwa.

© 2007 Bible Society of Burundi.

19Nuko uwuzorenga ibwirizwa na rimwe ryo mu yoroshe hanyuma y'ayandi, akigisha abantu ngo bagire batyo, mu bwami bwo mw'ijuru azokwitwa muto hanyuma y'abandi. Ariko uwuyitondera, akayigisha, uwo we azokwitwa mukuru mu bwami bwo mw'ijuru.

20Ariko ndababwira yuko ukugororoka kwanyu ni kutaruta uko abahinga b'ivyanditswe n'uko Abafarisayo, mutazoruha mwinjira mu bwami bwo mw'ijuru. "

21Mwarumvise ko aba kera babwiwe, ngo Ntukice; uwica aba ashikiwe no gutsindwa n'urubanza.

22Ariko jeho ndababwira yuko umuntu wese azoshavurira umuvukanyi wiwe azoba ashikiwe no gushirwa imbere y'intahe; uwuzotuka umuvukanyi wiwe, ngo wa kijuju we! azoba ashikiwe no gutsindwa n'urubanza; uwuzomutuka ati: "Wa gipfu we !" azoba ashikiwe no gutabwa mu muriro wa Gehinomu.

23Ni wajana ishikanwa ryawe ku gicaniro, ukahibukira ko hari ico upfa na mugenzawe,

24usige ishikanwa ryawe imbere y'igicaniro, ubanze ugende utunganye na mugenzawe, uce ugaruka, ushikane ishikanwa ryawe.

25Wuzure vuba n'uwukurega mukiri mu nzira; uwukurega ntagushikirize umucamanza, umucamanza akaguha umusoda, ugashirwa mw'ibohero.

26Ndakubwira ukuri yuko utazohava na gatoya utishuye n'imeya ry'imperera." "

27Mwarumvise ko vyavuzwe, ngo Ntugasambane.

28Ariko jeho ndababwira yuko umuntu wese araba umugore w'uwundi akamwifuza, aba amaze gusambana na we mu mutima wiwe.

29Ijisho ryawe ry'i buryo ni ryagutsitaza, urinogore, urite kure; vyokubera vyiza gupfa ijisho ryawe rimwe, hako umubiri wawe wose wotabwa muri Gehinomu.

30N'ukuboko kwawe kw'i buryo ni kwagutsitaza, uguce igikonjo, ugite kure; vyokubera vyiza gupfa urugingo rwawe rumwe, hako umubiri wawe wose woja muri Gehinomu.

31Kandi vyaravuzwe, ngo umuntu wese yirukana umugore wiwe ni amuhe ikete ryo kuvavanura.

32Ariko jeho ndababwira yuko umuntu wese yirukana umugore wiwe atamuhoye ubusambanyi, aba amusambanishije, kandi uwuzorongora uwahukanye azoba asambanye."

33Mwarumvise kandi ko aba kera babwiwe, ngo Ntukarahire ngo wirahuruze, ariko uzokorere Uhoraho ivyo wamusezeraniye;

34ariko jeho ndababwire; Ntukarahire na mba; nturahire ijuru, kuko ari intebe y'Imana;

© 2007 Bible Society of Burundi.

35canke isi, kuko ari yo ndava y'ibirenge vyayo; canke i Yerusalemu, kuko ari umurwa w'Umwami ahambaye.

36Nturahire umutwe wawe, kuko udashobora guhindura agashatsi na kamwe ngo kere canke ngo kirabure.

37Ariko ijambo ryanyu ribe Ego, ego; Oya, oya; ikirenze ivyo kiva kuri wa Mubi.

38Mwarumvise ko vyavuzwe, ngo ijisho rihorwe irindi, n'iryinyo rihorwe irindi;

39ariko jeho ndababwire: Ntimurwanye umunyakibi. Uwugukubise urushi mu musaya w'i buryo umuhindukirize n'uwundi;

40umuntu ni yagomba kukuburanya ngo akunyage ikanzu, umuhebere n'umutamana;

41uwugufata ngo umurenze umusozi umwe, umurenze n'uwa kabiri.

42Uwugusaba, umuhe, uwugomba ko umugurana, ntumutere ibitugu.

43Mwarumvise ko vyavuzwe, ngo mukunde umubanyi wanyu, mwanke umwansi wanyu.

44Ariko jeho ndababwire; Mukunde abansi banyu, musabire ababahama,

45kugira ngo mube abana ba So wo mw'ijuru, kuko atuma izuba ryiwe rirasira ababi n'abeza, kandi aha imvura abagororotsi n'abagabitanya.

46Ni mwakunda ababakunda, muri n'impera ki? Mbega abatozakori bo si ko bagira?

47Ni mwaramukanya n'incuti zanyu gusa, abandi muzoba mubarusha iki? Abanyamahanga bo si ko bagira?

48Mwebwe ni mube intungane, nk'uko So wo mw'ijuru ari intungane.

## Matayo 6

1Mwirinde ntimugakorere ivyiza vyanyu mu maso y'abantu kugira ngo babarabe. Ni mwagira mutyo, ntimuzogira impera kuri So wo mw'ijuru.

2Ni wagira ubuntu, ntuzovugishe inzumbeti imbere yawe, nk'uko indyarya zikora mu nsengero z'Abayuda no mu nzira, ngo bashimwe n'abantu; ndababwire ukuri. Baramaze guhabwa impera zabo.

3Ariko weho ni wagira ubuntu, ntumenyeshe ukubamfu kwawe ico ukuryo kwawe gukora,

4kugira ngo ubuntu bwawe bugirirwe mu mpisho; kandi So, abona ibihishijwe, azoguhera.

5Iyo musenga ntimukabe nka za ndyarya, kuko bakunda gusenga bahagaze mu nsengero z'Abayuda no mu mayirabiri, ngo biyerekane imbere y'abantu; ndababwire ukuri, baramaze guhabwa impera zabo.

© 2007 Bible Society of Burundi.

6Ariko weho, iyo usenga, uje haruguru mu nzu yawe, wugare umwango, usenge So aba mu mpisho, kandi So, akuboneye mu mpisho azoguhera.

7Kandi ni mwasenga, ntimukabomboranye amanwa nk'uko abanyamahanga bagira; biyumvira yuko bazokwumvirwa kubwo amajambo yabo menshi.

8Ntimuzose na bo, kuko So azi ivyo mukenye mutaramusaba.

9Nuko musenge mutya muti: ""Data wa twese wo mw'ijuru, izina ryawe ni ryubahwe,

10ubwami bwawe ni buze, ivyo ugomba ni bibe mw'isi nk'uko biba mw'ijuru.

11Uduhe ivyo kurya dukwiranye uyu musi;

12utubabarire ibicumuro vyacu, nk'uko natwe tubibabarira abaducumuyeko;

13kandi ntutujane mu bitwosha nabi, ariko udukize wa Mubi. [Kuko ubwami, ubushobozi n'icubahiro ari ivyawe ibihe bidashira. Amina. ]”

14Kuko ni mwaharira abantu ivyaha vyabo, na So wo mw'ijuru azobaharira namwe.

15Ariko ni mutaharira abantu ivyaha vyabo, na So na we ntazobaharira ivyaha vyanyu.

16Kandi iyo mwisonzesha, ntimwijirwe nk'uko za ndyarya zigira. Kuko biyoberanya mu maso ngo babonwe n'abantu ko bisonzesheje. Ndababwire ukuri, baramaze guhabwa impera zabo.

17Ariko weho, ni wisonzesha, wisige amavuta mu mutwe, wiyuhagire mu maso,

18ngo ntubonwe n'abantu ko wisonzesheje, ariko ubonwe na So aba mu mpisho, kandi So, abona ivyo mu mpisho, azoguhera.”

19Ntimukirundanirize ubutunzi mw'isi, aho inyenzi n'ingese bibumara, n'ibisuma bikimba bikabwiba.

20Ariko mwirundanirize ubutunzi mw'ijuru, aho inyenzi n'ingese bitabumara, hatariyo n'ibisuma vyimba ngo vyibe.

21Kuko aho ubutunzi bwawe buri, ari ho umutima wawe uzoba.

22Itara ry'umubiri ni ijisho. Ijisho ryawe iyo ari ryiza, umubiri wawe wose uba uri n'umuco.

23Ariko ijisho ryawe iyo ari ribi, umubiri wawe wose uba uri n'umwiza. Nuko wa muco uba muri wewe, woramuka ubaye umwiza, uwo mwiza wongana ute!

24Nta wusaba abami babiri, kuko yokwanka umwe, agakunda uwundi, canke yoguma kuri umwe, akagaya wa wundi. Ntimushobora gusaba Imana n'Itunga.

25Ni co gitumye ndababarira nti: "Ntimukaganyire amagara yanyu ku vyo muzorya canke ku vyo muzonywa, canke umubiri wanyu ku vyo muzokwambara. Mbega amagara ntaruta ivyo kurya, canke umubiri nturuta imyambaro?”

© 2007 Bible Society of Burundi.

26Ni murabe ibiguruka vyo mu kirere, ntibibiba, ntibishwabura, kandi ntivyimburira mu bigega, ariko So wo mw'ijuru arabitunga; mbega mwebwe ntimubiruta cane?

27Ni nde muri mwebwe yoshobozwa n'amaganya kwisumvya uko yareha nk'ukuboko kumwe?

28Ni kuki mwiganyira kuvyerekeye impuzu? Ni murabe amashurwe yo ku misozi ingene akura, ntiyirirwa aratama, ntajisha impuzu;

29ariko ndababwira yuko na Salomo mu bwiza bwiwe bwose atari ashajije nka rimwe muri ayo.

30None Imana ko yambika ivyatsi vyo ku misozi ityo, biriho uyu musi, ariko nk' ejo bigatererwa mu ziko, mbega ntizorushiriza kubambika, mwebwe abo ukwizera guke mwe?

31Nuko ntimukiganyire, ngo tuzorya iki? canke tuzonywa iki? canke tuzokwambara iki?

32Kuko ivyo vyose abanyamahanga ari vyo bitwaririka; ariko So wo mw'ijuru arazi ko ivyo vyose mubikena.

33Ariko mubanze mwitwaririke ubwami bw'Imana n'ukugororoka kwayo, ni ho ivyo vyose muzovyongerwa.

34Ntimukiganyire ivyo ejo, kuko umusi w'ejo uzoba wiganyira ku vyawo; umusi ukwiranye n'amagorwa yawo.

## Matayo 7

1Ntimugahinyurire mu mitima yanyu, namwe mukazohinyurwa.

2Kuko, uko muhinyura abandi, ari ko muzohinyurwa namwe; kandi ingero mugeramwo muzoyigererwa namwe.

3Urabira iki akabango kari mu jisho rya mugenzawe, kandi akabango kari mu jisho ryawe ntukitegereze?

4Wobwira ute mugenzawe uti: "Zana ndagutosore akabango kari mu jisho ryawe, nawe ufise akandi mu jisho ryawe?

5Wa ndyarya we, banza witosore akabango kari mu jisho ryawe, uheze ubone neza gutosora akabango kari mu jisho rya mugenzawe.

6Ivyera vy'Imana ntimukabihe imbwa, kandi amabuye yanyu y'agaciro ntimuyaterere ingurube, kugira ngo ntizizohonyange n'inzara zazo, maze zikabahindukirira, zikabatabagura.

7Musabe, muzohabwa; murondere, muzoronka; muramutse, muzokwugururirwa.

8Kuko uwusaba wese ahabwa; uwurondera aronka; uwuramutsa yugururirwa.

9Hari umuntu muri mwebwe, umwana wiwe yomusaba umutsima, akamuha ibuye?

© 2007 Bible Society of Burundi.

10Canke yomusaba ifi, akamuha inzoka?

11None mwebwe, ko muzi guha abana banyu ingabire nziza muri babi, mbega So wo mw'ijuru ntazorushiriza rwose guha ivyiza abamusavye?

12Nuko ivyo mugomba ko abantu babagirira vyose mube ari ko mubagirira namwe; kuko ivyo ari ivyagezwe n'ivyo abavugishijwe n'Imana. “

13Muce mw'irembo ripfunganye; kuko irembo ryagutse, n'inzira yagutse, ari vyo bijana abantu mu mahonero, kandi abahaca ni benshi.

14Ariko irembo ripfunganye, n'inzira ntoya, ni vyo bija mu bugingo, kandi abahabona ni bake.

15Mwirinde abigira abavugishwa n'Imana; baza kuri mwebwe bambaye nk'intama; ariko imbere ari amabingira y'inkazi.

16Muzobamenyera ku vyo bama. Mbega hari uwokwamura inzabibu ku munyinya, canke insukoni ku bitovu?

17Nuko igiti ciza cose cama ivyiza, ariko igiti kibi cama ibibi.

18Igiti ciza ntigishobora kwama ibibi, kandi igiti kibi ntigishobora kwama ivyiza.

19Igiti cose kitama ivyiza kiracibwa, kigatererwa mu muriro.

20Nuko muzobamenyera ku vyo bama.”

21Umuntu wese amvumereza ati: "Mwami, Mwami;" si we azokwinjira mu bwami bwo mw'ijuru, atari uwukora ivyo Data wo mw'ijuru agomba.

22Kuri wa musi benshi bazombwira, ngo Mwami, Mwami, ntitwavugishwa n'Imana mw'izina ryawe, ntitwasenda abadayimoni mw'izina ryawe, ntitwakora ibitangaza vyinshi mw'izina ryawe?

23Ni ho nzobajinjiburira nti: "Nta ho nigeze ndabamenya; mviraho, mwa bakora ibizira mwe.”

24Uwumva ayo majambo yanje wese, akayashira mu ngiro, asa n'umuntu w'umunyabwenge yubatse inzu yiwe ku rutare.

25Isegenya iragwa, inkukura iratwaza, igihuhuta kirahuhuta, bisurira kuri nya nzu, ntiyagwa, kuko yari ishimangiye ku rutare.

26Ariko uwumva ayo majambo yanje wese, ntayashire mu ngiro, asa n'umuntu w'imburabwenge, yubatse inzu yiwe ku musenyi.

27Isegenya iragwa, inkukura iratwaza, igihuhuta kirahuhuta, bisurira kuri nya nzu, irasenyuka, kandi isenyerana ryayo riba irikomeye.

28Yesu arangije ayo majambo yose, ishengero ritangazwa n'inyigisho ziwe,

29kuko yabigisha nk'uwufise ububasha, ntase n'abahinga b'ivyanditswe babo.

© 2007 Bible Society of Burundi.

# Matayo 8

[1]Amanutse uwo musozi, ishengero ryinshi riramukurikira.

[2]Maze umunyamibembe aza kuri we, aramupfukamira ati: "Mugenzi, ukunze, woshobora kumpumanura.”

[3]Agorora ukuboko, amukorako ati: "Ndakunze, humanuka.”

[4]Buno aca akira imibembe yiwe. Yesu aramubwira ati: "Wirinde, ntugire uwo ubwira, ariko genda wiyereke umuherezi, utange ishikanwa ryagezwe na Mose, ribe ikimenyetso kibabere icabona.”

[5]Ashitse i Kaperinawumu, haza intwazangabo z'abasoda ijana, iramwinginga

[6]ati: "Mwami wanje, umuhungu wanje ni ikimuga, aryamye mu nzu, arasinzikaye cane.”

[7]Aramubwira ati: "Ndaje kumukiza.”

[8]Intwazangabo iramwishura iti: "Mwami, ntibimbereye ko winjira mu nzu yanje; vuga ijambo gusa, uwo muhungu arakira.”

[9]Kuko nanje ndi umuntu agendera musi y'abanganza, mfise abasoda ntwara; iyo mbariye umwe ko agenda, aragenda; n'uwundi ko aza, akaza; nabarira umushumba wanje ko akora iki, akagikora.”

[10]Yesu avyumvise, biramutangaza, abwira abamukurikiye ati: "Ndababwire ukuri, sinaribwabone ukwizera kungana gutyo no mu Bisirayeli.

[11]Ndababwira yuko benshi bazoza, bavuye mu buseruko no mu burengero, bazokwicarana na Aburahamu, Isaka na Yakobo mu bwami bwo mw'ijuru;

[12]ariko abana b'ubwo bwami bazohindirwa hanze mu mwiza, ni ho hazoba amarira no kuryanya insya z'amenyo.”

[13]Yesu abwira uyo ntwazangabo ati: "Igire, bikubere nk'uko wizeye." "Nuko wa muhungu aca akira uwo mwanya.

[14]Yesu yinjiye mu nzu kwa Petero, abona inabukwe aryamye afashwe n'umururumbo.

[15]Amukora ku kuboko, umururumbo urazima; aravyuka, aramuzimana.

[16]Ku kagoroba, bamuzanira benshi binjiwemwo n'abadayimoni; izo mpwemu mbi azirukanisha ijambo, akiza abari barwaye bose,

[17]ngo ivyavuzwe n'uwavugishwa n'Imana Yesaya biboneke, ngo Ubwiwe ni we yatwara ubumuga bwacu, akikorera n'indwara zacu.

[18]Yesu abonye ishengero ryinshi rimukikije, agera ko bajabuka hakurya.

[19]Haza umuhinga w'ivyanditswe, aramubwira ati:" "Mwigisha, ndagukurikira aho uja hose.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

[20]Yesu aramubwira ati: "Imbwebwe ziri n'imyobo, n'ibiguruka mu kirere biri n'ivyari; ariko Umwana w'umuntu we ntagira aho arambika umusaya."

[21]Uwundi mu bigishwa aramubwira ati: "Mugenzi, banza undekure, ngende mpambe data."

[22]Ariko Yesu aramubwira ati: "Nkurikira, reka abapfuye bahambe abapfuye babo."

[23]Atambukira mu bwato, abigishwa biwe baramukurikira.

[24]Haza igihuhuta gikomeye mu kiyaga, bituma ubwato buzimirira mu mipfunda; ariko we yari asinziriye.

[25]Baraza baramukangura bati: "Mugenzi, dukize, turapfuye."

[26]Arababaza ati: "Ni igiki kibateye ubwoba, mwa bafise ukwizera guke mwe?" Buno aravyuka azibiza ingunza n'ikiyaga, haba agahwekere rwose.

[27]Maze abo bantu baratangara bati: "Uwu ni umuntu ki, umuyaga n'ikiyaga ko bimwumvira?"

[28]Afashe hakurya mu gihugu c'Abagadareni, babiri binjiwemwo n'abadayimoni baramusanganira bava mu masenga y'imva, bari bakaze cane, bituma ata wushobora guhita muri iyo nzira.

[29]Barasemerera bati: "Dupfa iki nawe ga Mwana w'Imana? Uje hano kutwica nabi igihe cacu kitarashika?"

[30]Kure yabo hari ubusho bw'ingurube nyinshi zirisha.

[31]Abadayimoni baramwinginga bati: "Namba udusenda, uturungike muri uriya mukuku w'ingurube."

[32]Arababwira ati: "Ni mugende." Bava muri abo bantu, baragenda, baja muri izo ngurube. Wa mukuku wose wirukira ku gatembwe, zisuka mu kiyaga, zihonera mu mazi.

[33]Abaziragira barahunga; bashitse mu gisagara bavuga ivyo babonye vyose n'ivyo abari binjiwemwo n'abadayimoni.

[34]Abo muri ico gisagara bose baja gusanganira Yesu. Bamubonye, baramwinginga ngo ave mu ntara yabo.

## Matayo 9

[1]Aja mu bwato, arajabuka, ashika mu gisagara c'i wabo.

[2]Bamuzanira ikimuga bagiteruye mu nderuzo. Yesu abonye ukwizera kwabo, abwira ico kimuga ati: "Humura mwana wanje, ivyaha vyawe urabihariwe."

[3]Bamwe mu bahinga b'ivyanditswe baribwira bati: "Uwo aratyojeje."

© 2007 Bible Society of Burundi.

4 Yesu amenye ivyo biyumvira arababaza ati: "Ni igiki kibateye kwiyumvira nabi mu mitima yanyu?”

5 None icoroshe ni ikihe, ni ukuvuga nti: "Uhariwe ivyaha vyawe; canke ni ukuvuga nti: ' Vyuka, ugende?'“

6 Ariko kugira ngo mumenye ko Umwana w'umuntu afise ububasha mw'isi bwo guharira ivyaha buno abwira ikimuga ati: "Vyuka, wikorere inderuzo yawe, utahe." “

7 Aravyuka arataha.

8 Ishengero ribibonye, riratinya, rihimbaza Imana yahaye abantu ububasha bene ubwo.

9 Yesu ahavuye, abona umuntu yitwa Matayo, yicaye aho yatoreza ikori. Aramubarira ati:" "Nkurikira." "Ava hasi, aramukurikira.

10 Kandi Yesu acicaye mu nzu hamwe kwa Matayo ariko ararya, haza benshi mu batozakori n'abanyavyaha, basangira na Yesu n'abigishwa biwe.

11 Abafarisayo babibonye, babaza abigishwa biwe bati:" "Ni igiki gitumye umwigisha wanyu asangira n'abatozakori n'abanyavyaha?”

12 Avyumvise, aravuga ati: "Abakomeye nta co bagombera umuvuzi, atari abarwaye.”

13 Mugende mwige iri jambo, muritahure, ngo imbabazi ni zo ngomba, si ibimazi; kuko ntaje guhamagara abagororotsi, atari abanyavyaha.

14 Kuri we haza abigishwa ba Yohana bati: "Ni igiki gituma twebwe n'Abafarisayo twisonzesha kenshi, abigishwa bawe ntibisonzeshe?”

15 Yesu arababaza ati: "Abatowe bobabara bate bakiri kumwe n'umukwe?"Hari imisi izoza umukwe akurwe muri bo, ni ho bazokwisonzesha.

16 Nta wokwomeka ikiraka c'igitambara gishasha ku mpuzu y'umushire, kuko ico kiraka gitabura impuzu, intoboro ikarushiriza kuba nini.

17 Nta wotara umutobe w'umuvinyu mu mikuza y'insato ibombotse; imikuza yoturika, umuvinyu ugashirira hasi, imikuza igapfa. Ariko umutobe w'umuvinyu bawutara mu mikuza mishasha, vyompi bikarama.

18 Akibabwira ivyo, haza umukuru w'isengero ry'Abayuda aramupfukamira ati: "Umwana wanje w'umukobwa aracikanye ubu nyene, ni uze se, umurambikeko ikiganza, asubire abe muzima.”

19 Yesu ava hasi, aramukurikira, bo n'abigishwa biwe.

20 Buno umugore atakaza amaraso menshi, yari abimaranye imyaka icumi n'ibiri, amuturuka inyuma, akora ku buyonga bw'impuzu yiwe;

21 yari yiyumviriye mu mutima ati: "N'iyo nokora ku mpuzu yiwe gusa, nokira.”

22 Buno Yesu arakebuka aramubona, aramubwira ati: "Humura, mwana wanje, ukwizera kwawe kuragukijije." Nya mugore akira uwo mwanya.

© 2007 Bible Society of Burundi.

23Yesu ashikiriye inzu y'uwo mukuru, abona abavuza imyironge n'abantu benshi bakoma induru,

24arababwira ati: "Ni muhave, kuko umukobwa atahwereye, ariko asinziriye." "Baramutwenga bamushimanga.

25Abantu bamaze guhindirwa hanze, arinjira, amufata ukuboko, umukobwa aravyuka.

26Iyo nkuru ikwira muri ico gihugu cose.

27Yesu avayo, akiriko aragenda impumyi zibiri ziramukurikira zisemerera ziti:" "Tugirire imbabazi, mwana wa Dawidi."

28Ashitse mu nzu, za mpumyi ziza kuri we. Maze Yesu arazibaza ati: "Murizeye ko nshobora kubikora?" Na zo ziti: "Ego me, Mwami."

29Aca akora ku maso yabo ati: "Bibabere nk'uko mwizeye."

30Amaso yabo arahumuka. Yesu arabihanikiriza ati: "Murumva, ntihagire umuntu abimenya." "

31Ariko basohotse bamukwiza muri ico gihugu cose.

32Bano bagisohoka, bamuzanira ikiragi cinjiwemwo na dayimoni.

33Dayimoni amaze gusendwa ico kiragi kiravuga. Kandi ishengero riratangara riti:" "Mu Bisirayeli ntiharibwaboneke ibimeze bityo."

34Ariko Abafarisayo baravuga bati: "Umukuru w'abadayimoni ni we amushoboza kwirukana abadayimoni."

35Yesu agendagenda mu bisagara vyose no mu mihana yose, yigisha mu nsengero z'Abayuda, avuga ubutumwa bwiza bw'ubwami, akiza indwara zose n'ubumuga bwose.

36Abonye ishengero, rimutera akagongwe, kuko bari bagowe, basabagiye nk'intama zitagira umwungere.

37Maze abwira abigishwa biwe ati: "Ivyimburwa ni vyinshi, ariko abimbuzi ni bo bake."

38Nuko ni mwinginge nyene ivyimburwa arungike abimbuzi mu vyimburwa vyiwe.

## Matayo 10

1Ahamagara abigishwa biwe icumi na babiri, abaha ububasha ku mpwemu zihumanye n'ubwo kuzisenda, no gukiza indwara zose n'ubumuga bwose.

2Amazina y'izo ntumwa icumi na zibiri ni aya: Uwa mbere ni Simoni, yitwa Petero, mwene nyina Andereya, Yakobo umwana wa Zebedayo, mwene nyina Yohana,

3Filipo, Barutolomayo, Toma, Matayo umutozakori, Yakobo umwana wa Alufayo, Tadayo,

© 2007 Bible Society of Burundi.

4Simoni Umunyakananayo na Yuda Isikaryota, umwe yamugura.

5Yesu atuma abo icumi na babiri arababarira ati: "Ntimuzojane inzira ija mu banyamahanga, canke mu bisagara vy'Abasamariya.

6Ariko muje mu ntama zazimiye zo mu nzu ya Isirayeli.

7Uko mugenda kwose mwigishe muti: 'Ubwami bwo mw'ijuru buri hafi.'

8Mukize abarwaye, muzure abapfuye, mukize abanyamibembe, musende abadayimoni. Mubiherewe ubusa, mubitangire ubundi.

9Ntimutekere izahabu canke amahera canke ibingorongoro mu mipfuko yanyu,

10canke isaho y'induhuro, kandi ntimujane n'amakanzu abiri, canke ibirato canke inkoni, kuko umukozi akwiye impembo yiwe.

11Igisagara cose canke imihana muzoshikamwo, muhabaze uwubereye, mumurarire gushitsa aho muzovirayo.

12Mucinjira mu nzu muyiramutse;

13nya nzu ni yaba ibereye, amahoro yanyu azoyizako. Ni yaba itabereye, amahoro yanyu azobagarukako.

14Kandi umuntu ni atabakira, canke ngo yumve amajambo yanyu, muve muri ino nzu canke muri nya gisagara, muzokunkumure umukungugu wo mu birenge vyanyu.

15Ndababwire ukuri, ku musi w'imanza igihugu c'i Sodomu n'i Gomora kizogira agahengekezo kurusha nya gisagara."

16Raba ndabatumye muri nk'intama mu mabingira hagati. Nuko mugire ubwenge nk'inzoka, mumere nk'inuma ata karohe.

17Mwirinde abantu. Bazobashengerana mu manza, babatonagurire mu nsengero zabo.

18Bazobajana imbere y'abaganza n'abami babampora, muzoba ikimenyetso kibabere icabona, bo n'abanyamahanga.

19Ariko babashengeranye, ntimuzohagarikire imitima ico muvuga n'ingene muzokivuga, kuko ivyo muzovuga muzobihabwa muri ako kanya.

20Kuko atazoba ari mwebwe muvuga, azoba ari Mpwemu wa So avugira muri mwebwe.

21Umuntu azoshengerana uwo bavukana ngo bamwice, na se w'umwana azomushengerana, n'abana bazogabagabira abavyeyi babicishe.

22Muzoba mwanswe na bose babahora izina ryanje; ariko uwihangana agashitsa kw'iherezo ni we azokira.

23Ni babahama mu gisagara kimwe, muhungire mu kindi; kuko ndababwira ukuri yuko mutazohetura ibisagara vyose vy'i Bwisirayeli, Umwana w'umuntu ataraza.

© 2007 Bible Society of Burundi.

24 Umwigishwa ntaruta umwigisha; kandi n'umushumba ntaruta shebuja.

25 Umwigishwa biramubereye kumera nk'umwigisha wiwe, n'umushumba nka shebuja. Nyene urugo ko bamwise Beyezebuli, none abo mu rugo rwiwe ntibazorushiriza kubita batyo?

26 Nuko ntimuzobatinye, kuko ata catwikiriwe kitazotwikururwa, canke kinyegejwe kitazomenyekana.

27 Ico ndababaririra mu mwiza muzokivugire mu muco, kandi ico mwongorewe mu gutwi muzokivugire ku mazu hejuru.

28 Ntimuzotinye abica umubiri, badashobora kwica ubugingo, canecane mutinye uwushobora guhonereza ubugingo n'umubiri muri Gehinomu.

29 Mbega utunyoni tubiri ntitugurwa ikuta? Ariko muri two nta na kamwe gakorokera hasi, So atabizi.

30 Ariko n'umushatsi wo ku mitwe yanyu wose waraharuwe.

31 Nuko ntimutinye: mwebwe muruta utunyoni twinshi.

32 Umuntu wese azonyaturira imbere y'abantu, nanje nzomwaturira imbere ya Data wo mw'ijuru.

33 Ariko umuntu wese azonyihakanira imbere y'abantu, nanje nzomwihakanira imbere ya Data wo mw'ijuru.

34 Ntimwiyumvire ngo naje gutera amahoro mw'isi, sinaje gutera amahoro, atari inkota.

35 Kuko naje guteranya umwana na se, umukobwa na nyina, umukazana na inabukwe.

36 Kandi abansi b'umuntu bazoba abo mu rugo rwiwe.

37 Uwukunze se canke nyina akabandutisha, ntaba ankwiye; kandi uwukunze umuhungu wiwe canke umukobwa wiwe akabandutisha, ntaba ankwiye.

38 Kandi uwutikoreye umusaraba wiwe ngo ankurikire, ntaba ankwiye.

39 Uwurokora ubugingo bwiwe azobubura; n'uwuheba ubugingo bwiwe kubwanje azoburonka.

40 Uwubakiriye aba anyakiriye, kandi uwunyakiriye aba yakiriye uwantumye.

41 Uwakira umuntu avugishwa n'Imana kuko avugishwa na yo azohabwa impera nk'iyo uwuvugishwa n'Imana; uwakira umuntu agororotse kuko agororotse azohabwa impera nk'iyo umugororotsi.

42 Kandi uwuzoha umwe muri abo bato urwato rw'amazi apfutse gusa kuko ari umwigishwa, ndababwira ukuri yuko atazobura impera yiwe.

## Matayo 11

© 2007 Bible Society of Burundi.

1 Yesu arangije gutuma abigishwa biwe icumi na babiri, avayo, aja kwigisha abantu no kuvuga ivyo Imana mu bisagara vyabo.

2 Ariko Yohana ari mu nzu y'imbohe, yumva ivyo Kristo akora, atuma abigishwa biwe kumubaza

3 ati: "Mbega uri wa wundi akwiye kuza, canke twitege uwundi?"

4 Yesu arabishura ati: "Ni mugende mubarire Yohana ivyo mwumva n'ivyo mubona."

5 Impumyi zirahumuka, abacumbagira bagenda neza, abanyamibembe barakizwa, ibipfamatwi birumva, abapfuye barazurwa, aboro barabwirwa ubutumwa bwiza.

6 Kandi Harahiriwe uwo ivyanje bitazotsitaza.

7 Abo bagiye, Yesu atangura kubwira ishengero ivya Yohana ati: "Mwagiye mu bugaragwa kuraba iki?"Mbega ni irenga rihungabanywa n'umuyaga?

8 Ariko mwagiye kuraba iki? Mbega ni umuntu yambaye impuzu z'igiciro? Erega abambaye impuzu z'igiciro baba mu ngo z'abami.

9 Ariko mwajanywe ni igiki? Mbega kwari ukuraba umuntu avugishwa n'Imana? Ego me ni co; kandi ndababwire, aruta uwuvugishwa n' Imana cane.

10 Uwo ni we yanditswe, ngo umve ngira ntume intumwa yanje imbere y'amaso yawe, Ikuroranirize inzira imbere yawe.

11 Ndababwire ukuri; Mu bavyawe n'abagore ntihigeze kuboneka umuntu aruta Yohana Umubatizi. Ariko umutoya mu bwami bwo mw'ijuru aramuruta.

12 Uhereye mu gihe ca Yohana Umubatizi ugashitsa n'ubu baraharanira ubwami bwo mw'ijuru, ababuharanira babunyakurisha ubuhizi.

13 Kuko abavugishwa n' Imana bose bavugishijwe, bo n'ivyagezwe, gushitsa igihe ca Yohana,

14 kandi ni mwaba mugomba kuvyemera, uwo ni we Eliya yavuzwe ko azoza.

15 Uri n'amatwi yumva, ni yumve.

16 Ariko abo uru ruvyaro ndabagereranye ni igiki? Basa n'abana bicaye mw'idandarizo, bahamagara abavukanyi babo

17 bati: "Twavugije imyironge ntimwatamba; twakomye induru, ntimwaboroga."

18 Kuko Yohana yaje, atarya, atanywa, bavuga bati: "Ahagazweko na dayimoni."

19 Umwana w'umuntu yaje, arya, anywa, baravuga bati: "Nguwu umukunzi w'inda n'umunoho w'umuvinyu, incuti y'abatozakori n'abanyavyaha."Kandi ubwenge burangwa ko bugororotse n'ibikorwa vyabwo.

20 Buno atangura guhambarira ibisagara yakoreyemwo ibikomeye vyinshi, kuko batihanye.

© 2007 Bible Society of Burundi.

21Ati: "Uzobona ibara Korazini; uzobona ibara Betsayida; kuko ibikomeye vyakorewe muri mwebwe iyo biba vyarakorewe muri Tiro n'i Sidoni, baba barihanye kera, bakambara amagunira, bakisiga iminyota.”

22Ariko ndababwire; muri Tiro n'i Sidoni hazogira agahengekezo ku musi w'imanza kurusha mwebwe.

23Nawe, Kaperinawumu, mbega uzoshirwa hejuru ushike kw'ijuru? Oya, uzocokezwa i kuzimu; kuko ibikomeye vyakorewe muri wewe, iyo biba vyarakorewe i Sodomu, haba hakiriho gushika n'ubu.

24Ariko ndababwira yuko igihugu c'i Sodomu kizogira agahengekezo ku musi w'imanza kurusha wewe.

25Muri ico gihe Yesu aravuga ati: "Ndaguhimbaza, Data, Mwami w'ijuru n'isi, kuko ivyo wabihishije abanyabwenge n'abahanga, ukabihishurira inzoya.”

26Ego me, Data, kuko washimye ko biba bityo imbere yawe.

27Vyose nabihawe na Data, kandi nta wuzi Umwana, atari Data, na Data, nta wumuzi, atari Umwana, n'uwo Umwana agomba kumuhishurira.

28Ni muze kuri jewe mwese abananiwe n'abaremerewe, ndabaruhura;

29mwikoreze ingata yanje, munyigireko; kuko ndi umugwaneza, niyoroheje mu mutima; namwe muzoronka uburuhukiro bw'imitima yanyu.

30Kuko ingata yanje itababaza, n'umutwaro wanje uhwahutse.

## Matayo 12

1Muri ico gihe Yesu aca mu mirima y'ingano kw'isabato. Abigishwa biwe bashonje, batangura kumyoza ingano, barazihekenya.

2Abafarisayo babibonye, baramubwira bati: "Mbega abigishwa bawe ko bakora ikizira gukorwa kw'isabato!”

3Na we arababaza ati: "Nta ho murasoma ico Dawidi yakoze, aho yari asonzanye n'abari kumwe na we;

4ingene yinjiye mu nzu y'Imana, akarya imitsima yagenewe gushikanirwa Imana, yari umuziro kuri we no ku bari kumwe na we, uretse abaherezi bonyene?

5Canke nta ho murasoma mu vyagezwe ingene kw'isabato abaherezi, iyo bari mu rusengero, bazirura isabato, ntibabeko igicumuro?”

6Ariko ndababwira yuko hano hari uwuruta urusengero.

7Iyo muba mwari muzi iri jambo ico rivuga, ngo imbabazi ni zo ngomba, si ibimazi; ntimuba mutsindishije abatariko igicumuro.

8Kuko Umwana w'umuntu ari Umwami w'isabato.

© 2007 Bible Society of Burundi.

9Avayo, yinjira mu rusengero rw'Abayuda.

10Kandi harimwo umuntu anyunyutse ukuboko. Baramubaza bati: "Mbega biremerwa gukiza kw'isabato? Ngo baronke uko bomurega.”

11Arabishura ati: "Ni nde muri mwebwe yoba afise intama imwe ikagwa mu cobo kw'isabato, ntayifate ngo ayikureyo?”

12Mbega none umuntu ntaruta intama cane? None rero biremerwa gukora ivyiza kw'isabato.

13Maze abwira uwo muntu ati: "Gorora ukuboko kwawe." Arakugorora, kurakira, gukomera nk'ukundi.

14Abafarisayo barasohoka, bamugira inama ngo babone ingene bomwica.

15Yesu abimenye, arahava. Benshi baramukurikira, abakiza bose.

16Arabihaniza ngo ntibagende baramwandagaza,

17ngo ivyavuzwe n'uwavugishwa n'Imana Yesaya bishike,

18ngo nguwu umushumba wanje natoranije, Nkunda, ahimbara umutima wanje; Nzoshira Mpwemu wanje kuri we, Azomenyesha abanyamahanga imanza azocibwa.

19Ntazosinda, kandi ntazoyogora, Kandi nta wuzokwumva ijwi ryiwe mu nzira;

20Ntazohohosha irenga rivunitse, N'urumuri ruyenga ntazoruzimya, Gushitsa aho azotsindira intahe;

21Kandi izina ryiwe ni ryo abanyamahanga bazokwizigira.

22Maze bamuzanira impumyi y'ikiragi yinjiwemwo na dayimoni, arayikiza; ico kiragi kiravuga, kirahumuka.

23Ishengero ryose rirumirwa riti: "Mbega uwu yoba wa mwana wa Dawidi?”

24Ariko Abafarisayo bavyumvise baravuga bati: "Uwu nta kindi kimushoboza kwirukana abadayimoni, atari Beyezebuli, umukuru w'abadayimoni.”

25Amenye ivyo biyumvira, arababwira ati: "Ubwami bwose iyo bwitandukanije ubwabwo burahona. Igisagara cose n'umuryango wose iyo vyitandukanije ntibirama.”

26Na Satani, yosenda Satani, yoba yitandukanije ubwiwe; none ubwami bwiwe bworama bute?

27Ariko jewe namba Beyezebuli ari we anshoboza kwirukana abadayimoni, abana banyu bashobozwa na nde kubasenda? Ni co gituma ari bo bazobatsindisha.

28Ariko Mpwemu w'Imana ni yaba ari we anshoboza kwirukana abadayimoni, noneho ubwami bw' Imana burabashikiriye.

© 2007 Bible Society of Burundi.

29None umuntu yoshobora ate kwinjira mu nzu y'umuntu w'inkomezi kumusahura
ibintu atabanje kuboha wa munyenkomezi? Maze akabona kumusahura ivyo mu nzu
yiwe.

30Uwutamperereyeko ni umwansi wanje, kandi uwudasukiranya nanje arasanzaza.

31Kubwo ivyo ndababwira yuko icaha cose n'ugutyoza, abantu bazobiharirwa; ariko
ugutyoza kuri Mpwemu ni icaha kitazoharirwa.

32Umuntu wese azotyoza umwana w'umuntu azobiharirwa, ariko uwutyoza Mpwemu
Yera ntazobiharirwa, naho hoba muri iki gihe canke mu gihe kizoza.

33Ni mube muvuga igiti ko ari ciza n'ivyo camye ko ari vyiza, canke mube muvuga
igiti ko ari kibi n'ivyo camye ko ari bibi; kuko igiti kimenyekanira ku vyo camye.

34Mwa bana b'inzoka mwe, mwoshobora mute kuvuga ivyiza muri babi? Ibibogaboga
mu mutima ni vyo akanwa kavuga.

35Umunyangeso nziza akura ivyiza mw'itunga ryiwe ryiza; umunyangeso mbi akura
ibibi mw'itunga ryiwe ribi.

36Kandi ndababwira yuko ijambo ryose risunitswe n'impwemu abantu bavuga
bazoribazwa ku musi w'imanza.

37Amajambo yawe ni yo azotuma utsinda canke amajambo yawe ni yo azotuma
utsindwa.

38Abafarisayo n'abahinga b'ivyanditswe bamwe baramubwira bati: "Mwigisha,
turagomba kuraba ikimenyetso ukora.”

39Arabishura ati: "Abo uruvyaro rubi rw'uguhemuka barondera ikimenyetso; kandi nta
kimenyetso bazohabwa, atari ikimenyetso c'uwavugishwa n'Imana Yona.”

40Nk'uko Yona yamaze imisi itatu n'amajoro atatu mu nda y'urufi, ni ko n'Umwana
w'umuntu azomara imisi itatu n'amajoro atatu i kuzimu.

41Abagabo b'i Ninewe bazovana hasi n'abo uru ruvyaro ku musi w'imanza,
babatsindishe; kuko bihanye aho bumviye ubutumwa buvuzwe na Yona; kandi raba,
uwuruta Yona ari hano.

42Umwamikazi w'igihugu co mu bumanuko azovana hasi n'abo iki gihe ku musi
w'imanza, abatsindishe; kuko yavanywe ku mpera y'isi no kwumva ubwenge bwa
Salomo; kandi raba, uwuruta Salomo ari hano.

43Impwemu ihumanye iyo ivuye mu muntu, ica ahatagira amazi, irondera
uburuhukiro, ikabubura.

44Ikavuga iti: "Reka nsubire mu nzu yanje navuyemwo."Ihashitse, igasanga igaragara,
ikubuye, iteguritse.

© 2007 Bible Society of Burundi.

45 Igaca igenda, ikazana izindi mpwemu indwi ziyirusha ububi, zikinjira, zikahaba. Ivya nyuma vy'uwo muntu bikarusha ivya mbere ububi. Ni ko bizoba no ku b'iki gihe kibi.

46 Akivugana n'ishengero, nyina n'abavukanyi biwe bari bahagaze hanze, bagomba kubonana na we.

47 Umwe aramubwira ati: "Erega umuvyeyi wawe na barumuna bawe bahagaze hanze, baragomba ko mubonana.”

48 Yishura uno abimubwiye ati: "Mama ni nde? Canke bene mama ni ba nde?”

49 Atunga urutoke abigishwa biwe ati: "Ngaba mama na bene mama.”

50 Kuko umuntu wese akora ivyo Data wo mw'ijuru agomba ari we murumunanje, mushikanje na mama.

## Matayo 13

1 Kuri uwo musi Yesu asohoka ava mu nzu, yicara ku nkombe y'ikiyaga.

2 Ishengero ryinshi rikoranira kuri we, bimutera gutambukira mu bwato, yicaramwo; ishengero ryose rihagarara i musozi.

3 Ababwira vyinshi mu migani, aravuga ati: "Umubivyi yasohoye imbuto.”

4 Akibiba, zimwe zigwa i ruhande y'inzira, inyoni ziraza, zirazinobagura.

5 Izindi zigwa ku rutare, hatari ivu ryinshi; zica zimera vuba, kuko ata vu ryinshi ririho.

6 Izuba rirashe, ziraraba, kuko ata mizi zifise, ziruma.

7 Izindi zigwa mu mahwa, amahwa arakura, arazinyoha.

8 Izindi zigwa mw'ivu ryiza, zihunda impeke, zimwe ijana, izindi mirongo itandatu, izindi mirongo itatu bityobityo.

9 Uri n'amatwi ni yumve.

10 Abigishwa baramwegera, baramubaza bati: "Mbega ikigutera kubigishiriza mu migani ni igiki?”

11 Arabishura ati: "Mwebwe mwahawe kumenya amabanga y'ubwami bwo mw'ijuru, ariko bo ntibabihawe.”

12 Kuko uwufise azohabwa, bikamucagatira; ariko uwudafise azokwakwa n'ico yari asanzwe afise.

13 Igituma ndababwirira mu migani, ni uko iyo baraba batabona; kandi iyo bumva batumva, badatahura.

© 2007 Bible Society of Burundi.

14 Kandi ivyo uwavugishwa n' Imana Yesaya yavuze, bibashitseko, ngo kwumva muzokwumva, ariko ntimuzoruha mubitahura; Kuraba muzoraba, ariko ntimuzoruha muvyihweza.

15 Kuko umutima w'ubu bwoko ucuramye, Amatwi yabo akaba ari bihurugutwi, Amaso yabo bakayahumiriza; Ngo ntibarabishe amaso, Ntibumvishe amatwi, Ntibatahurishe imitima, Ngo bahindukire, Ndabakize.

16 Ariko amaso yanyu arahiriwe, kuko abona, n'amatwi yanyu, kuko yumva.

17 Ndababwira ukuri yuko abavugishwa n'Imana benshi n'abagororotsi benshi banyoterewe kubona ivyo mubona, ntibabibona, no kwumva ivyo mwumva, ntibavyumva.

18 Nuko mweho ni mutahure umugani w'umubivyi.

19 Uwumva wese ijambo ry'ubwami ntarimenye, wa Mubi araza, agasahura ikibibwe mu mutima wiwe. Uwo ni we yabibwe i ruhande y'inzira.

20 Uwabibwe ku rutare ni we yumva ijambo, agaca aryakirana umunezero;

21 ariko ntagira imizi muri we, ahagarara umwanya muto; iyo yadutsweko n'amarushwa bo n'akadenderezo azira iryo jambo, bica bimutsitaza.

22 Uwabibwe mu mahwa ni we yumva iryo jambo, ariko umwitwaririko w'ivyo isi n'uruhendo rw'ubutunzi bikanyoha iryo jambo, ntiyame imbuto.

23 Uwabibwe mw'ivu ryiza ni we yumva iryo jambo, akaritahura, uwo ni we rero yama imbuto, umwe akagira ijana, uwundi mirongo itandatu, uwundi mirongo itatu, bityobityo.

24 Abacira uwundi mugani ati: "Ubwami bwo mw'ijuru busa n'umuntu yabivye imbuto nziza mu murima yiwe.

25 Abantu basinziriye, haza umwansi wiwe abiba urwamfu mu buro hagati, arigira."

26 Bumaze gusesa no kuyangika, urwamfu ruca ruraboneka.

27 Abashumba ba nyene urugo baraza baramubaza bati: "Mbega mutungwa, ntiwabivye imbuto nziza mu murima wawe? None urwamfu rwavuye hehe?"

28 Na we ati: "Ni umuntu w'umwansi yagize atyo."Ba bashumba baramubaza bati: "None uragomba ko tugenda kurutororokanya?"

29 Ati: "Oyaye, kuko kumbure mu kurandura urwamfu mworandurana n'uburo.

30 Mureke bikurane vyose gushitsa mw'igenya."Maze mu gihe c'igenya nzobwira abagenyi nti: "Mubanze mutororokanye urwamfu, murutekere imikama, muruturire; ariko uburo mubwimburire mu kigega canje."

31 Abacira uwundi mugani ati: "Ubwami bwo mw'ijuru busa n'akabuto ku giti, umuntu yakiriye akagatera mu murima wiwe."

© 2007 Bible Society of Burundi.

32 Kandi ni kanzinya hanyuma y'imbuto zose, ariko iyo gakuze kaba kanini kakaruta ibirimwa vyose, kakaba igiti. Maze inyoni zo mu kirere zikaza zikarika mu mashami yaco.

33 Abacira uwundi mugani ati: "Ubwami bwo mw'ijuru busa n'umwambiro, umugore yakiriye akawuvanga n'ingero zitatu z'ifu, gushitsa aho iribututumbire yose.”

34 Ivyo vyose Yesu yabibwiye ishengero mu migani, nta co yababwiye atabaciriye umugani.

35 Ni co catumye ivyo umuntu yavugishwa n'Imana yavuze biboneka, ngo Nzoteranura akanwa kanje, nce imigani, Nzovuga ivyahishijwe uhereye ku kuremwa kw'isi.

36 Maze asezera ishengero, yinjira mu nzu. Abigishwa biwe baza kuri we bati: "Dusobanurire umugani w'urwamfu rwo mu murima.”

37 Na we arabishura ati: "Uwubiba imbuto nziza ni Umwana w'umuntu.”

38 Imirima ni isi. Imbuto nziza ni bo bana b'ubwami. Urwamfu ni abana ba wa Mubi.

39 Umwansi yarubivye ni wa mugarariji. Igenya ni umuhero w'isi. Abagenyi ni abamarayika.

40 Nk'uko urwamfu rutororokanywa rugaturirwa mu muriro, ni ko bizoba ku muhero w'isi.

41 Umwana w'umuntu azotuma abamarayika biwe, na bo bazotororokanya ibitsitaza vyose n'abakoze ibizira, babikure mu bwami bwiwe.

42 Bazobaterera mw'itanure ry'umuriro, ni ho hazoba amarira no kuryanya insya z' amenyo.

43 Buno abagororotsi bazokwaka nk'izuba mu bwami bwa Se. Uwuri n'amatwi ni yumve. “

44 Ubwami bwo mw'ijuru busa n'izahabu zanyegejwe mw'itongo. Umuntu yazubutseko, arazihisha, aragenda, umunezero umutera gushora ivyo afise vyose, agura iryo tongo.

45 Kandi ubwami bwo mw'ijuru busa n'umudandaza arondera utubuye tw'igiciro twiza.

46 Abonye akabuye kamwe, k'igiciro kinini, aragenda, ashora ivyo afise vyose, arakagura.

47 Kandi ubwami bwo mw'ijuru busa n'urusenga runiniya rwaterewe mu kiyaga, rukoranya ifi z'ubwoko bwose.

48 Rwuzuye, barukwegera i musozi, baricara barobanurira inziza mu giseke, imbi barazita.

49 Uko ni ko bizoba ku muhero w'isi. Abamarayika bazoza, barobanure ababi mu bagororotsi,

© 2007 Bible Society of Burundi.

50babaterere mw'itanure ry'umuriro; ni ho hazoba amarira no kuryanya insya z' amenyo.

51Mbega ivyo murabitahuye vyose?" Baramwishura bati: "Ego me.”

52Na we arababwira ati: "Ni co gituma umuhinga w'ivyanditswe wese, amaze guhinduka umwigishwa w'ivyo ubwami bwo mw'ijuru asa na nyene urugo asokorora mu vyo atunze ibintu bisha n'ivya kera.”

53Yesu amaze guca iyo migani, avayo.

54Aja mu ntara y'i wabo, yigishiriza mu rusengero rw'Abayuda, bituma batangara bati: "Ubu bwenge n'ivyo bitangaza mbega uwu yabikuye hehe?" “

55Mbega si wa mwana w'umubaji? Nyina ntiyitwa Mariya, kandi abavukana na we si Yakobo, Yosefu, Simoni na Yuda?

56Bashiki biwe ntibari i wacu bose? None ivyo vyose yabikuye hehe?”

57Ivyiwe birabatsitaza. Yesu arababwira ati: "Umuntu avugishwa n'Imana ntabura icubahiro atari mu ntara y'i wabo no mu nzu y'i wabo.”

58Kandi nta bitangaza vyinshi yahakoreye, kubwo ukutizera kwabo.

## Matayo 14

1Muri ico gihe umwami Herode yumva inkuru za Yesu.

2Abwira abagendanyi biwe ati: "Uwo ni Yohana Umubatizi yazutse mu bapfuye; ni co gituma ivyo bitangaza bikorera muri we.”

3Kuko Herode yari yarafashe Yohana, akamuboha, akamushira mw'ibohero kubwa Herodiya, muka Filipo mwene se.

4Kuko Yohana yari yarabwiye Herode ati: "Ni ikizira ko umurongoye.”

5Yagomba kumwica, ariko atinya abantu, kuko bamwiyumvira ko ari umuntu avugishwa n'Imana.

6Umusi wo kwibutsa ukuvuka kwa Herode ushitse, umukobwa wa Herodiya atambira hagati ya bose, anezereza Herode.

7Ni co catumye amwemerera amurahiye ko amuha ico yomusaba cose.

8Na we amaze kwoshwa na nyina aramusaba ati: "Mpera ngaha ku mubehe umutwe wa Yohana Umubatizi." “

9Buno umwami arijirwa; ariko kubwa za ndahiro, no kubwo abasangira na we, abwiriza ko bawumuha;

10atuma mw'ibohero ngo bace izosi Yohana.

11Bazana umutwe ku kibehe, bawuha wa mwigeme, awushira nyina.

© 2007 Bible Society of Burundi.

12Abigishwa biwe baraza, bajana ikiziga, baragihamba, maze baja kubikira Yesu.

13Yesu avyumvise, arahava, agenda mu bwato, aja ahantu h' agahinga kwihihererayo. Ishengero rivyumvise, riva mu bisagara, rimukurikira rijanye inkokoro

14Avuye mu bwato, abona ishengero ryinshi, rimutera akagongwe, abakiriza abarwaye.

15Bugorovye, abigishwa baramwegera bati:" "Mbega hano hantu ko ari mu gahinga, kandi bukaba buriko burira, sezera abantu baje mu mihana kwirondererayo ivyo kurya."

16Yesu arababwira ati: "Ntibarinda kugenda. Ni mube ari mwebwe mubagaburira."

17Baramwishura bati: "Nta vyo dufise hano atari udutsima dutanu n'udufi tubiri."

18Na we ati: "Ni mubinzanire hano."

19Abwira abantu kwicara hasi ku vyatsi, yakira ya mitsima itanu na za fi zibiri, ararangamiza, araba mw'ijuru, arabihezagira; amanyagura ya mitsima, ayiha abigishwa, abigishwa bagaburira ishengero.

20Bararya bose, barahaga. Begeranya utumanyagu tw'imisigazwa twuzura ibiseke icumi na bibiri.

21Kandi abariye bari abagabo nk'ibihumbi bitanu, ukuyemwo abagore n'abana.

22Uwo mwanya agobera abigishwa ngo batambukire mu bwato babe barajabuka hakurya, nawe abanze gusezera ishengero.

23Ahejeje gusezera ishengero, aduga umusozi gusenga yiherereye. Bwagorovye ariyo ari wenyene gusa.

24Ubwato bushitse hagati mu kiyaga, bari batamijwe n'imipfunda, kuko umuyaga wari ubaturutse imbere.

25Buri mu guca, aza aho bari, agendesha amaguru hejuru ku kiyaga.

26Abigishwa bamubonye agendesha amaguru hejuru ku kiyaga, basimbwa n'umutima bati: "Ni igihume; bahindishwa agashitsi n'ubwoba."

27Uwo mwanya Yesu arababwira ati: "Humura, ni jewe, ni mureke gutinya."

28Petero aramwishura ati: "Mushingantahe, asangwa ari wewe, mbarira nze aho uri ku mazi."

29Na we ati: "Ngo." Petero yururuka mu bwato, agendesha amaguru ku mazi, ngo aje aho Yesu ari.

30Abonye igihuhuta, aratinya, atanguye kuroka aratakamba ati: "Ntabara Mugenzi."

31Buno Yesu agorora ukuboko, aramucakira, aramubwira ati: "Yewe w'ukwizera guke, ni igiki cagukekeranishije?"

© 2007 Bible Society of Burundi.

32Buriye mu bwato, umuyaga uraca.

33Abari mu bwato baramupfukamira bati: "Ni ukuri uri Umwana w'Imana.”

34Bamaze kujabuka hakurya, bafata i musozi mu ntara y'i Genesareti.

35Abantu b'aho hantu baramumenya, batumatumanako muri ico gihugu cose,
bamuzanira abarwaye bose,

36baramwinginga ngo bakore ku buyonga bw'impuzu yiwe gusa, ababukozeko bose
barakira.

## Matayo 15

1Maze Abafarisayo n'abahinga b'ivyanditswe baza kuri Yesu bavuye i Yerusalemu,
baramubaza

2bati: "Ni kuki abigishwa bawe barenga imigenzo twabwirijwe n'aba kera, ntibakarabe
iyo bagira barye?”

3Na we arababaza ati: "None mweho, ni igiki catumye murenga icagezwe c' Imana ku
bwo imigenzo yanyu?”

4Kuko Imana yavuze iti: "Wubahe so na nyoko;"kandi iti: "Uwututse se canke nyina
ntazobure kwicwa.”

5Ariko mweho, mugira muti: "Umuntu wese abwira se canke nyina ko ico yari
kumufashisha ari co azoshikanira Imana,

6ntiyubahe se canke nyina."None mwatituye ijambo ry'Imana ku bwo imigenzo
yanyu.

7Mwa ndyarya mwe, Yesaya yavuze neza ivyo yavugishwa n'Imana kuri mwebwe

8ati: "Aba bantu banyubahisha iminwa yabo, Ariko imitima yabo iri kure yanje.”

9Bansengera ubusa, Kuko inyigisho bigisha ari ivyagezwe n'abantu.

10Ahamagara ishengero araribwira ati: "Ni mwumve, mubitahure.

11Ikija mu kanwa si co gihumanya umuntu; ariko ikiva mu kanwa ni co
kimuhumanya.”

12Buno abigishwa baramwegera, baramubarira bati: "Urazi yuko Abafarisayo bumvise
iryo jambo bakavunika umutima?”

13Arabishura ati: "Icatewe cose kidatewe na Data wo mw'ijuru atateye,
kizorandurwa.”

14Ni mubareke! Ni impumyi zijana izindi. Ariko impumyi yojana iyindi mpumyi
zompi zogwa mu cobo.

15Petero Aramwishura ati: "Dusobanurire uwo mugani.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

16Na we aramubaza ati: "Mbega namwe muracari imburabwenge?

17Ntimutahura yuko ikintu cose kigiye mu kanwa kija mu nda kigaca mu nzira yaryo?

18Ariko ibiva mu kanwa biba biturutse mu mutima, ni vyo bimuhumanya.

19Kuko mu mutima havamwo ivyiyumviro bibi: ubwicanyi, ubusambanyi, ubushakanyi, ubwivyi, kwagiriza abandi ibinyoma, ibitutsi.

20Ivyo vyose ni vyo bihumanya umuntu. Ariko kurisha intoke zidakaravye si vyo bimuhumanya.”

21Yesu arahava, aja hafi muri Tiro n'i Sidoni.

22Umunyakananikazi ava mu ntara yaho aratakamba ati: "Ngirira imbabazi se Mugenzi, Mwana wa Dawidi, umukobwa wanje afashwe nabi na dayimoni.”

23Na we ntiyamwishura ijambo na rimwe. Abigishwa biwe baza kuri we, baramwinginga bati: "Murungike, kuko agenda aratuvugiriza induru inyuma.”

24Arabishura ati: "Sinatumwe ku bandi, atari ku ntama zazimiye z'inzu ya Isirayeli.”

25Uwo Munyakananikazi amushikiriye aramupfukamira ati: "Ntabara se Mugenzi.”

26Yesu aramwishura ati: "Si vyiza gufata umutsima w' abana ukawuterera utubwa.”

27Na we ati: "Nka ko, Mugenzi, kuko utubwa na two twirira utuvunguka dukorokera musi y'imeza ya ba nyene two.”

28Buno Yesu aramwishura ati: "Ukwizera kwawe ni kwinshi nyina wanje; bikubere nk'uko ugomba." "Umukobwa wiwe aca akira uwo mwanya.

29Yesu arahava, aja ku kiyaga c'i Galilaya, aduga umusozi, yicaraho.

30Abantu benshi baza kuri we bazanye abacumbagira, ibimuga, impumyi, ibiragi, n'abandi benshi, babashira imbere y'ibirenge vyiwe, arabakiza.

31Bituma ishengero ritangara ribonye ibiragi bivuga, ibimuga bikomera, abacumbagira bagenda neza n'impumyi zibona; bahimbaza Imana y'Abisirayeli.

32Yesu ahamagara abigishwa biwe ati:" "Ishengero rinteye akagongwe, kuko uwu ari umusi ugira gatatu turi kumwe, none ntibagira ico barya. Ariko singomba kubasezera bashonje, ntibagwire isari mu nzira.”

33Abigishwa baramubaza bati: "Twokura hehe muri ubu bugaragwa imitsima ingana ityo yo guhaza iri shengero ringaho?”

34Yesu arababaza ati: "Mufise imitsima ingahe?" Na bo bati: "Ni indwi, n'udufi dukeya.”

35Abarira ishengero ngo ryicare hasi.

36Yakira ya mitsima indwi na za fi, arabishimira, arabimanyagura, abihereza abigishwa biwe, babigaburira ishengero.

© 2007 Bible Society of Burundi.

37Bararya bose, barahaga; begeranya imisigazwa y'utumanyagu, yuzura ibiseke indwi.

38Abariye bari abagabo ibihumbi bine, abagore n'abana bataharuwemwo.

39Asezera ishengero, atambukira mu bwato, aja mu gihugu c'i Magadani.

## Matayo 16

1Abafarisayo n'Abasadukayo baraza, barondera bamugeza ko abereka ikimenyetso kiva mw'ijuru.

2Na we arabishura ati: "Iyo bugorovye, muvuga ko buca haba umuco, kuko ijuru rikeye."

3Mu mutwenzi, muvuga muti: "Hagira hafurungane, kuko ijuru ritukura, kandi ryiraburaniwe."Murazi kugenzura ijuru uko risa, ariko ibimenyetso vy'ibihe ntimuzi kubigenzura.

4Abo igihe kibi c'ubuhumbu barondera ikimenyetso, kandi nta kimenyetso bazohabwa, atari ikimenyetso ca Yona. "Abasigaho, arigira.

5Abigishwa bafata hakurya, bari bibagiye gutekera imitsima.

6Yesu arababwira ati:" "Mugabe, mwirinde umwambiro w'Abafarisayo n'Abasadukayo."

7Biburanya bati: "Ntitwatekeye imitsima."

8Yesu arabimenya, arababaza ati: "Yemwe abo ukwizera guke, ni igiki gitumye mwiburanya ngo nta mitsima mufise?

9Ntimuraruha mubimenya, ntimwibutse ya mitsima itanu ku bihumbi bitanu, n'ibiseke mwegeranije uko vyangana?

10Canke ya mitsima indwi ku bihumbi bine, n'ibiseke mwegeranije uko vyangana?

11Ni igiki kibabujije gutahura ko ntababwiye imitsima? Ariko mwirinde umwambiro w'Abafarisayo n'Abasadukayo." "

12Buno batahura ko atababwiye kwirinda umwambiro w'umutsima butsima, ariko ko ari inyigisho z'Abafarisayo n'Abasadukayo.

13Yesu aja mu misozi ihera i Kayisariya mu bwa Filipo, abaza abigishwa biwe ati:" "Abantu bagira ngo Umwana w'umuntu ndi nde?"

14Na bo bati: "Bamwe bagira ngo uri Yohana Umubatizi, abandi ngo uri Eliya," " abandi ngo uri Yeremiya canke umwe mu bavugishwa n'Imana."

15Arababaza ati: "Ariko mweho, mugira ngo ndi nde?"

16Simoni Petero aramwishura ati: "Uri Kristo, Umwana w'Imana nzima."

17Yesu aramwishura ati: "Uri umuhirwe, Simoni umwana wa Yona, kuko ata w'inyama n'amaraso yabiguhishuriye, ariko ni Data wo mw'ijuru."

© 2007 Bible Society of Burundi.

18Nanje ndakubwira yuko uri Petero, kandi kuri urwo rutare nzorwubakako ishengero ryanje, kandi amarembo y'i kuzimu ntazorishobora.

19Nzoguha impfunguzo z'ubwami bwo mw'ijuru; kandi ico uzoboha mw'isi kizoba kiboshwe mw'ijuru; n'ico uzobohora mw'isi kizoba kibohowe mw'ijuru. “

20Maze yihanikiriza abigishwa ngo ntihagire umuntu babwira ko ari we Kristo.

21Kuva ubwo, Yesu atangura guserurira abigishwa biwe ko akwiye kuzoja i Yerusalemu no kuzobabazwa uburyo bwinshi, ababazwa n'abashingantahe, abaherezi bakuru n'abahinga b'ivyanditswe, no kuzokwicwa, no kuzozurwa ku musi ugira gatatu.

22Petero aramwihererana, atangura kumwamira ati:" "Ntibikabe, Mwami wanje, ntibizokubeko namba.”

23Ahindukirira Petero ati: "Herera inyuma yanje, Satani; uri ikintsitaza, kuko ivyo Imana atari vyo ubabaye, ubabaye ivyo abantu.”

24Buno Yesu abwira abigishwa biwe ati: "Umuntu ni yagomba kunkurikira, ni yiyanke, yikorere umusaraba wiwe, ankurikire.”

25Kuko uwugomba gukiza ubugingo bwiwe azobubura, ariko uwuzoheba ubugingo bwiwe kubwanje azoburonka.

26Kandi umuntu vyomumarira iki kwunguka ivyo mw'isi vyose abitangiye ubugingo bwiwe? Canke umuntu yotanga iki ngo acungure ubugingo bwiwe?

27Kuko Umwana w'umuntu azohava aza afise ubwiza bwa Se, azananye n'abamarayika biwe; ni ho azoca yishura umuntu wese ibikwiranye n'ivyo yakoze.

28Ndababwire ukuri; muri aba bahagaze hano harimwo bamwe batazobona urupfu gushitsa aho bazobonera Umwana w'umuntu aje mu bwami bwiwe.

## Matayo 17

1Imisi itandatu ishize, Yesu ajana Petero, Yakobo na mwene nyina Yohana; abadugana igisozi kirekire ari bonyene.

2Akayanganira imbere yabo, mu maso hiwe haka nk'izuba, impuzu ziwe zera nk'umuco.

3Maze Mose na Eliya barababonekera, bavugana na we.

4Petero abwira Yesu ati: "Mugenzi, bitubereye vyiza ko turi hano; ni wabigomba ndubaka amahema atatu hano, rimwe ryiwawe, irindi rya Mose, irindi rya Eliya.”

5Akivuga, haza igicu gikayangana, kibatera igitutu; kandi ijwi riva muri nya gicu riti: "Nguwu Umwana wanje nkunda, akampimbara; ni mumwumve.”

6Abigishwa bavyumvise, bubama hasi baratinya cane.

7Yesu arabegera, abakorako ati: "Ni muve hasi, ntimutinye.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

8Bunamuye amaso, ntibagira uwundi babona, atari Yesu wenyene.

9Bariko baramanuka ico gisozi, Yesu arabihanikiriza ngo "ntihagire umuntu babwira ivyo beretswe, gushitsa aho Umwana w'umuntu azozukira avuye mu bapfuye."

10Abigishwa baramubaza bati: "None rero ni igiki gituma abahinga b'ivyanditswe bavuga yuko Eliya akwiye kubanza kuza?"

11Arabishura ati: "Eliya azoza koko, aroranye vyose neza.

12Ariko ndababwira yuko Eliya yamaze kuza, yamara ntibamumenye, ariko bamugize uko bagomba kwose. Uko ni ko n'Umwana w'umuntu agira ababazwe na bo." "

13Buno abigishwa batahura ko yababwiye Yohana Umubatizi.

14Bashikiriye ishengero, umuntu araza aramupfukamira

15ati:" "Mwami wanje, girira ikigongwe umwana wanje, kuko arwaye intandara, arasinzikaye cane. Kuko kenshi na kenshi agwa mu muriro no mu mazi.

16Namuzaniye abigishwa bawe, ariko vyabananiye kumukiza."

17Yesu arishura ati: "Yemwe abo iki gihe mutizera b'inkozi z'ibibi, nzogeza ryari kubana namwe; nzogeza ryari kubihanganira? Ni mumunzanire hano."

18Yesu aramukankamira, dayimoni amuvamwo, umuhungu aca akira uwo mwanya.

19Maze abigishwa baza kuri Yesu biherereye, baramubaza bati: "Tweho ni iki catumye bitunanira kumusenda?"

20Arabishura ati: "Ni ukwizera kwanyu guke."Ndababwire ukuri; namba mufise ukwizera kungana n'akabuto k'igiti, mwobwira kino gisozi muti: "Imuka aha, uje harya, kandi cokwimuka. Kandi nta kitazobashobokera.

[ 21Ariko bene urya ntakurwamwo n'ikindi atari ugusenga no kwisonzesha. ]"

22Bakigendagenda i Galilaya, Yesu arababwira ko "umwana w'umuntu azoshirwa mu maboko y'abantu,

23kandi bazomwica, maze ku musi ugira gatatu azozurwa." " Barababara cane.

24Bashitse i Kaperinawumu, abatoza ikori ry'urusengero baza kuri Petero, baramubaza bati:" "Harya Umwigisha wanyu ntatanga ikigabane ca shekeli ?" Na we ati: "Egome, aragitanga."

25Binjiye mu nzu, Yesu aramwitanga, aramubaza ati: "Uvyiyumvira gute ga Simoni? Abami bo mw'isi batangisha canke batoza abahe? Ni ababo canke ni abandi?"

26Aramwishura ati: "Ni abandi." Yesu aramubwira ati: "Noneho ababo baracuna."

27Ariko kugira ngo ntitubatsitaze, genda ku kiyaga, uteremwo igera, wakire ifi ifatwa ubwa mbere, uyasamike, urasangamwo shekeli, ube ari yo ujana, uyatange mw'izina ryanje n'iryiwawe.

© 2007 Bible Society of Burundi.

# Matayo 18

[1]Muri uwo mwanya abigishwa baza kuri Yesu, baramubaza bati: "Umukuru mu bwami bwo mw'ijuru ni nde?”

[2]Ahamagara akana, agahagarika hagati yabo,

[3]arababwira ati: ""Ndababwire ukuri, ni mutirimbura ngo mucike nk'abana bato, ntimuzoruha mwinjira mu bwami bwo mw'ijuru.”

[4]Nuko uwuzokwicisha bugufi nk'aka kana ni we mukuru mu bwami bwo mw'ijuru.

[5]Kandi uwuzokwakira akana kamwe nk'aka mw'izina ryanje azoba anyakiriye.

[6]Ariko uwuzotsitaza n'umwe muri abo bato banyizera, icoroshe ni uko bomubohera urusyo ruremereye kw'izosi, akadobezwa mu kuzimu mu kiyaga.

[7]Isi izobona ibara ku bwo ibitsitaza, kuko ivyo bitsitaza bitazobura kuza, ariko uwo muntu azana igitsitaza azobona ibara.

[8]Ukuboko kwawe canke ikirenge cawe ni hagira ikigutsitaza muri vyo, ugice, ugite kure; vyokubera vyiza kwinjira mu bugingo ucitse igikonjo canke ikirenge, hako utererwa mu muriro utazima ufise amaboko yompi n'ibirenge vyompi.

[9]Kandi ijisho ryawe ni ryagutsitaza, urinogore urite kure; vyokubera vyiza kwinjira mu bugingo upfuye ijisho, hako utererwa muri Gehinomu y'umuriro ufise amaso yompi.”

[10]Mwirinde ntimukengere n'umwe muri aba bana bato; ndababwira yuko mw'ijuru abamarayika babo bama baraba mu nyonga ha Data wo mw'ijuru.

[ [11]Kandi Umwana w'umuntu yaje gukiza icari cazimiye. ]

[12]Muvyiyumvira gute? Umuntu afise intama ijana, imwe yozimira, ntiyosiga zimwe mirongo icenda n'icenda, akagenda mu misozi kurondera iyazimiye?

[13]Kandi iyo ayibonye, ndababwira ukuri yuko ayinezererwa kuyirutisha zimwe mirongo icenda n'icenda zitazimye.

[14]Ni ko bidakundwa mu maso ya So wo mw'ijuru ko umwe muri abo bato apfa rubi. “

[15]Mugenzawe ni yakugirira nabi, ugende umuhishuke mwiherereye; ni yakwumvira, uzoba wigaruriye mugenzawe.

[16]Ariko ni atakwumvira, ujane umwe canke babiri, kugira ngo ijambo ryose rizoringanizwe, bivuye mu kanwa k'ivyabona bibiri canke bitatu.

[17]Ni yo atabumvira ubwire ishengero; ni yanka kwumvira ishengero na ryo, kuri wewe azoba nk'umupagani n'umunyavyaha.

[18]Ndababwire ukuri; ivyo muzoboha mw'isi vyose bizoba biboshwe mw'ijuru; kandi ivyo muzobohora mw'isi vyose bizoba bibohowe mw'ijuru.

© 2007 Bible Society of Burundi.

19Kandi ndababwira ukuri yuko babiri muri mwebwe ni bahuriza inama mw'isi gusaba ikintu cose, Data wo mw'ijuru azokibakorera.

20Kuko aho babiri canke batatu bazoba bakoraniye mw'izina ryanje, nanje nzoba ndi hagati muri bo.”

21Maze Petero aza kuri we, aramubwira ati: "Mushingantahe, incuti yanje ni yangirira nabi, nzomuharira ngeze kangahe? Ngeze indwi?”

22Yesu aramubwira ati: "Jeho sindakubwira yuko ugeza indwi, ariko ugeze indwi indwi gushitsa incuro mirongo irindwi.”

23Ni co gituma ubwami bwo mw'ijuru busa n'umwami yagomvye gusuzuma ivyo yabikije abantu biwe.

24Atanguye guharura, bamuzanira uwamuririye umwenda w'italanto ibihumbi icumi.

25Ariko kuko atari afise ico yishura, shebuja agera ko bamugura hamwe n'umugore, abana n'ivyo afise vyose, ngo umwenda wishurwe.

26Wa muntu yikubita hasi, amwitembagaza imbere ati: "Mwami, nyihanganira, nzokwishura vyose.”

27Shebuja w'uyo muntu amugirira akagongwe, aramurekura, amuhebera wa mwenda amufitiye.

28Uno muntu asohotse, abona uwo bakorana yamuririye umwenda w'idenariyo ijana; aramufata, amugwa mu gahogo ati: "Nyishura ivyo umperaniye.”

29Uwo bakorana yikubita hasi, aramutakambira ati: "Nyihanganira, nzokwishura vyose.”

30Wa wundi aranka, aragenda, amushirisha mw'ibohero, gushitsa aho azomwishurira ivyo amufitiye.

31Bagenzi biwe babonye ibibaye, barababara cane, baragenda babwira shebuja ibibaye vyose.

32Buno shebuja aramuhamagaza, aramubwira ati: "Wa muntu mubi we, naguhebeye wa mwenda wose aho wantakambira:

33none nawe ntiwari ukwiye kugirira imbabazi mugenzawe, nk'uko nanje nazikugiriye?”

34Shebuja araraka, amuhereza abasoda, gushitsa aho azokwishurira ivyo amufitiye vyose.

35Na Data wo mw'ijuru ni ko azobagirira, ni mutaharirana, umuntu wese ngo aharire umuvukanyi wiwe bivuye mu mutima.

## Matayo 19

© 2007 Bible Society of Burundi.

1Yesu arangije ayo majambo, ava i Galilaya, aja mu ntara y'i Yudaya hakurya ya Yorodani.

2Ishengero ryinshi riramukurikira, abakirizayo.

3Abafarisayo baza kuri we bamugeza, baramubaza bati: "Mbega biremerwa ko umuntu yirukana umugore ku bwo inyanduruko y'ikintu cose?”

4Na we arabishura ati: "Nta ho murasoma yuko uhereye mu bihe vya kera Rurema yabaremye bari uburyo bubiri,

5ikavuga ko ari co gituma umuntu azosiga se na nyina, akabana n'umugore wiwe ubutakivana, bompi bakaba umubiri umwe?

6Bituma batakiri babiri, ariko baba babaye umubiri umwe. Nuko ico Imana yamatanije, umuntu ntazokimature.”

7Baramubaza bati: "None se, ni igiki catumye Mose agera ko bamuha ikete ryo kuvavanura, akamwirukana?”

8Arabishura ati: "Mose yabarekuye kwirukana abagore banyu kuko imitima yanyu ikomantaye. Ariko uhereye ubwa mbere hose ntivyari bimeze bityo.

9Ariko ndababwire, Umuntu wese yirukana umugore wiwe atamuhoye ubusambanyi, akarongora uwundi, aba asambanye; kandi uwurongora uwahukanye aba asambanye.

10Abigishwa baramubwira bati: "Ivyo umugabo n'umugore asangwa bimeze bityo, noneho kurongora ni ikigoye.”

11Na we arababwira ati: "Si bose bashobora kwemera iryo jambo, atari ababihawe.”

12Kuko hari inkone zavutse zityo uhereye kuva mu nda za ba nyina, kandi hari inkone zakonwe n'abantu, kandi hari inkone zavutse zityo uhereye mu nda za ba nyina, kandi hari inkone zikona ubwazo kubwo ubwami bwo mw'ijuru. Uwushobora kuvyemera ni avyemere.

13Bamuzanira abana bato, ngo abarambikeko ibiganza, abasabire. Ariko abigishwa barabakankamira.

14Yesu arababwira ati: "Ni mureke abana bato, ntimubabuze kuza aho ndi, kuko ubwami bwo mw'ijuru ari ubwo abameze batyo." “

15Abarambikako ibiganza, avayo.

16Haza umuntu kuri we, aramubaza ati:" "Mwigisha, nkore iciza ki ngo ndonke ubugingo budashira?”

17Aramubaza ati: "Umbariza iki iciza?"Inziza ni Imwe. Ariko asangwa ugomba kwinjira mu bugingo, witondere ivyagezwe.

18Aramubaza ati: "Ni ibihe?" Yesu aramwishura ati: "Ntukice, ntugasambane, ntukibe, ntukagirize abandi ibinyoma,

© 2007 Bible Society of Burundi.

19wubahe so na nyoko, kandi ukunde mugenzawe nk'uko wikunda.”

20Wa musore aramubwira ati: "Ivyo vyose naravyitondeye; hari ikindi mpajije?”

21Yesu aramubwira ati: "Asangwa ugomba kuba intungane rwose, genda ushore ivyo utunze, ugabire aboro, ni ho uzogira itunga mw'ijuru, uteko uze, unkurikire.”

22Uwo musore yumvise iryo jambo, agenda ababaye, kuko yarafise itunga ryinshi.

23Yesu abwira abigishwa biwe ati: "Ndababwire ukuri, biragoye ko umutunzi yinjira mu bwami bwo mw'ijuru.”

24Kandi ndababwira yuko icoroshe ari ingamiya guca mu zuru ry'urushinge hako umutunzi yinjira mu bwami bw' Imana.

25Abigishwa bavyumvise baratangara cane bati: "None rero, ni nde ashobora gukizwa?”

26Yesu arabitegereza, arababwira ati: "Kubwo abantu ico ntigishoboka, ariko ku Mana vyose birashoboka.”

27Buno Petero aramubaza ati: "Mbega twebwe ko twaretse vyose tukagukurikira; none tuzohabwa iki?”

28Yesu arababwira ati: "Ndababwira ukuri yuko mwebwe abankurikiye, aho Umwana w'umuntu azovyagirira ku ntebe y'ubwiza bwiwe, igihe co kuvyarwa ukundi gusha, namwe muzokwicara ku ntebe icumi na zibiri, mucire imanza imiryango icumi n'ibiri y'Abisirayeli.”

29Umuntu wese yasize urugo canke abavukanyi biwe canke bashiki we canke se canke nyina canke abana canke itongo kubwo izina ryanje, azobishumbushwa umurengera, kandi azoragwa ubugingo budashira.

30Ariko benshi b'imbere bazoba abo inyuma, kandi abo inyuma bazoba abo imbere.

## Matayo 20

1Ubwami bwo mw'ijuru busa na nyene urugo azindutse kurondera abamukorera mu ruzabibu rwiwe.

2Yemeranya n'abakozi ku musi ko azobaha idenariyo, abarungika mu ruzabibu rwiwe.

3Nko kw'isaha zitatu aragenda, abona abandi bihagarariye mu kaguriro ata co bakora.

4Na bo arababwira ati: "Namwe ni mugende mu ruzabibu, ndabagerera ivyo mukwiranye."Baragenda.

5Yongera kugenda kw'isaha zitandatu no ku y'icenda, agira kuno.

6Kandi nko kw'isaha icumi n'imwe aragenda, abona abandi bihagarariye; arababwira ati: "Mbega ko mwahagaze hano umusi wose ata co mukora?”

© 2007 Bible Society of Burundi.

7Baramwishura bati: "Ni uko ata waturaritse."Arababwira ati: "Namwe ni mungire mu ruzabibu.”

8Bugorovye, nyene umurima w'inzabibu abwira umukoresha wiwe ati: "Hamagara abakozi, ubagerere ingero zabo, utangurire mu bo hanyuma gushitsa ku ba mbere.”

9Abaje kw'isaha icumi n'imwe bahabwa idenariyo imwimwe

10Abatanguye kare baje, bagira ngo bagererwa ibirenze; ariko bahabwa idenariyo imwimwe na bo.

11Bayahawe bidodombera nyene umurima w'inzabibu

12bati: "Abaherutse kuza, bagakora isaha imwe gusa, none ko ubaringanije natwe twacumukuye umurango wose no mu ndugumba!”

13Na we yishura umwe muri bo ati: "Mugenzi wanje, sinkugiriye nabi; ntitwemeranije idenariyo imwe?

14Fata iyawe, ugende. Uwo wo hanyuma nagomvye kumugerera nkawe.

15Hari ikimbuza kugira uko ngomba mu vyanje? Canke ugize ijisho ribi kuko jewe ndi mwiza.

16Uko ni ko abo inyuma bazoba abo imbere, kandi abo imbere ba zoba abo inyuma.”

17Yesu agira aduge i Yerusalemu, yihererana na ba bigishwa icumi na babiri, maze bari mu nzira arababwira

18ati: "Ehe turaduze Yerusalemu, kandi Umwana w'umuntu azoshirwa mu maboko y' abaherezi bakuru n'abahinga b'ivyanditswe, bazomucira urubanza rwo gupfa,

19kandi bazomuha abanyamahanga ngo ashinyagurirwe, akubitwe, abambwe kandi ku musi ugira gatatu azozurwa.”

20Buno nyina w'abana ba Zebedayo aza kuri we, ari kumwe n'abahungu biwe, aramupfukamira, amusaba ijambo.

21Aramubaza ati: "Uragomba iki?" Na we ati: "Bivuge ko aba bahungu banje babiri ngo bazokwicare umwe i buryo bwawe uwundi i bubamfu mu bwami bwawe.”

22Yesu arishura ati: "Ntimuzi ico musaba. Mwoshobora kunywera ku gikombe jewe ngira nywereko?" Na bo bati: "Turashobora.”

23Arababwira ati: "Igikombe canje koko muzokinywerako, ariko gutanga ivyicaro i buryo bwanje i bubamfu, si ivyanje, atari abo Data yabiteguriye.”

24Bamwe icumi bavyumvise, bidodombera ivyo abo babiri bavukana.

25Yesu arabahamagara, arababwira ati: "Murazi yuko abaganwa b'amahanga bayatwaza amanyama, kandi n'abakuru bayo bayagirako ububasha.

26Muri mwebwe si ko biri. Ariko uwugomba kuba mukuru muri mwebwe azobe umukozi wanyu;

© 2007 Bible Society of Burundi.

27kandi uwugomba kuba uwo imbere azobe umushumba wanyu,

28nk'uko Umwana w'umuntu atazanywe no gukorerwa, atari ugukorera abandi, no gutanga ubugingo bwiwe ko incungu ya benshi.

29Bakiva i Yeriko, ishengero ryinshi riramukurikira.

30Impumyi zibiri zari zicaye i ruhande y'inzira, zumvise yuko Yesu ahaciye ziratakamba ziti: "Mwami, mwana wa Dawidi, tugirire imbabazi.”

31Ishengero rirazizibiranya ngo zihore. Zirushiriza gutakamba ziti: "Mwami, mwana wa Dawidi, tugirire imbabazi.”

32Yesu arahagarara, arazihamagara, arazibaza ati: "Mugomba ko ndabakorera iki?”

33Ziti: "Tugomba ko amaso yacu ahumuka Mwami.”

34Yesu azigirira akagongwe, akora ku maso yazo, zica zirahumuka, baramukurikira

## Matayo 21

1Bageze hafi y'i Yerusalemu, bashikira i Betifage ku musozi wa Elayono, Yesu atuma abigishwa babiri,

2arababarira ati: "Mugende muri iriya mihana iri imbere yanyu, muca mubona indogoba iziritseho n'inyana yayo; muziziture, muzinzanire.”

3Ni hagira uwubabaza, mumubwire muti: "Databuja ni we azigomba."Aca azirungika.

4Ivyo vyabayeho ngo ivyavuzwe n'uwavugishwa n' Imana bishike,

5ngo Mubwire umukobwa w'i Siyoni Muti: "Raba, Umwami wawe aje kuri wewe, Ari uwutekereje, agendera ku ndogoba, Mbere ni ku mukangara, inyana y'indogoba.”

6Abigishwa baragenda, babigenza nk'uko Yesu yababwiye,

7bazana indogoba n'inyana yayo, bazisasako impuzu zabo, yicarako.

8Abenshi mw'ishengero basasa impuzu zabo mu nzira, abandi baca amashami y'ibiti, bayasasa mu nzira.

9Kandi ishengero rimugiye imbere n'irimukurikiye rirasemerera rati: "Hoziyana, mwana wa Dawidi, hashemezwe uwuje mw'izina ry'Uhoraho, Hoziyana mw'ijuru.”

10Ashitse i Yerusalemu, igisagara cose kirashwabaduka, barabaza bati: "Uwo ni nde?”

11Abo mw'ishengero barabishura bati: "Uwo ni uwuvugishwa n'Imana, Yesu w'i Nazareti i Galilaya.”

12Yesu yinjira mu rusengero rw'Imana, ahindira hanze abadandariza mu rusengero n'abaruguriramwo bose, ahenura imeza y'abavunja amahera n'intebe z' abariko baragurwako inuma.

© 2007 Bible Society of Burundi.

13Arababwira ati: "Handitswe ngo ingoro yanje izokwitwa inzu yo gusengeramwo, ariko mwebwe mwayihinduye nk'isenga ry'abambuzi."

14Maze impumyi n'abacumbagira baza kuri we mu rusengero, arabakiza.

15Abaherezi bakuru n'abahinga b'ivyanditswe babonye ibitangaza akoze, n'abana basemererera mu rusengero, ngo Hoziyana mwana wa Dawidi; baritonganya,

16baramubaza bati: "Urumva ivyo bavuga?" Yesu arabishura ati: "Ego me; nta ho murasoma, ngo Mu kanwa k'abana bato n'abonka waroranijemwo ishimwe?" "

17Abasigaho, asokoroka mu gisagara, aja i Betaniya, ararayo.

18Kare mu gatondo ariko arasubira mu gisagara, yumva arashonje.

19Abonye umusukoni ku nzira, arawegera, ntiyagira ico awubonako, atari amababi gusa, arawubarira ati:" "Ntugapfe wamye insukoni uhereye ubu ugashitsa ibihe bidashira." Uwo musukoni uca ukabirana uwo mwanya.

20Abigishwa babibonye, baratangara bati: "Mbega uwu musukoni uwu mwanya ukabiranijwe ni igiki?"

21Yesu arabishura ati: "Ndababwire ukuri: Iyo muba muri n'ukwizera, mudakekeranya, ntimwokora ico uwu musukoni gusa, ariko mwobwira n'uwu musozi muti: "Shinguka, utabwe mu kiyaga; vyoba ko."

22Kandi ivyo muzosaba vyose musenze, mwizeye, muzobihabwa.

23Yinjiye mu rusengero, ariko arigisha, abaherezi bakuru n'abashingantahe b'ubwo bwoko baza kuri we, baramubaza bati: "Mbega ivyo ukora ubikoreshwa n'ububasha nyabaki? Kandi ni nde yaguhaye ubwo bubasha?"

24Yesu arabishura ati: "Nanje hinge ndababaze ijambo rimwe; ni mwarinyishura nanje mpeze ndababarire ububasha bunkoresha ivyo.

25None ukubatiza kwa Yohana kwaturutse hehe? Ni mw'ijuru, canke ni mu bantu?" Baravugana bati: "Ni twavuga ko ari mw'ijuru; ahava atubaza icatubujije kumwemera?

26Kandi ni twavuga ngo ni mu bantu; n'uko dutinya ishengero, kuko bose bavuga yuko Yohana yari uwuvugishwa n'Imana."

27Bishura Yesu bati: "Ntituhazi." Na we ati: "Nuko rero nanje sindababwira ububasha bunkoresha ivyo."

28Muvyumva gute? Habaye umuntu yarafise abahungu babiri, aragenda abarira umukuru ati: "Genda, mwana wanje, uwu musi uje gukora mu ruzabibu."

29Aramwishura ati: "Eka singenda."Maze hanyuma aririmbura, aragenda.

30Aja ku wa kabiri, amubwira kuno. Aramwishura ati: "Ndagiye muvyeyi; ntiyajayo."

© 2007 Bible Society of Burundi.

31None muri abo bompi ni uwuhe yakoze ivyo se agomba? Baramwishura bati: "Ni
uwa mbere." Yesu arababwira ati: ""Ndababwira ukuri yuko abatozakori
n'abasambanyikazi babatanga kwinjira mu bwami bw'Imana.”

32Kuko Yohana yaje muri mwebwe agendera mu nzira yo kugororoka, kandi
ntimwamwemera. Ariko abatozakori n'abasambanyikazi baramwemeye. Namwe
mubibonye, no hanyuma ntimwirimbura ngo mumwemere.

33Ni mwumve uwundi mugani. Habaye nyene urugo yateye umurima w'inzabibu;
awuzitirira uruzitiro, yimbamwo ubwato bw'ikinogo, yubakamwo umutara,
awusigarana abarimyi, aja mu kindi gihugu." “

34Nuko igihe c'iyera kigomba kugera, atuma abakozi biwe kuri ba barimyi ngo babahe
inzabibu ziwe.

35Maze abo barimyi bafata babakozi biwe, umwe baramushishagura, uwundi
baramwica, uwundi bamutera amabuye.

36Yongera gutuma abandi bakozi barengeye aba mbere; babagira kuno.

37Hanyuma abatumako umwana wiwe ati: "Bazosonera umwana wanje.”

38Abo barimyi babonye wa mwana wiwe, baravugana bati: "Urya ni we samuragwa:
ni muze tumwice, tuzokwegukire umugabane wiwe.”

39Baramufata bamuhindira inyuma y'umurima w'inzabibu, baramwica.

40None nyene umurima ni yiyizira azogira ate, abo barimyi?”

41Baramwishura bati: "Abo babi azobica rubi, umurima w'inzabibu na we
awusigarane abandi barimyi, bazohora bamuha inzabibu igihe cazo.”

42Yesu arababaza ati: "Nta ho murasoma mu vyanditswe, ngo ibuye abubatsi bagaye
Ni ryo ryahindutse irigumya imfuruka. Ivyo vyavuye k'Uhoraho, Kandi ni igitangaza
mu maso yacu?

43Ni co gitumye ndababwira yuko ubwami bw'Imana muzobwakwa, bugahabwa
ihanga ryama imbuto zabwo.

44Ariko uwuzogwa kuri iryo buye azovunagurika; ariko uwo rizogwako
rizomuvungura.”

45Maze abaherezi bakuru n'Abafarisayo bumvise iyo migani yiwe, bamenya ko ari bo
avuga.

46Barondeye ingene bomufata, batinya abantu, kuko bamwiyumvira ko ari
uwuvugishwa n'Imana.

## Matayo 22

1Yesu yongera kuvuganira na bo mu migani

© 2007 Bible Society of Burundi.

2ati: "Ubwami bwo mw'ijuru busa n'umwami atahisha ubukwe bw'umwana wiwe arongora.

3Atuma abagendanyi biwe, ngo bahamagare abatorewe gutaha ubukwe, banka kuza."

4Yongera gutuma abandi bagendanyi ati:"Mubwire abatowe muti: 'Raba amazimano yiwe yayateguye, ishuri n'ingumba vyiwe vyabazwe, kandi vyose biratunganye; ni muze mutahe ubukwe."

5Ariko barirengagiza barigira, umwe aja mw'itongo ryiwe, uwundi mu bidandazwa vyiwe.

6Abasigaye bafata abo bagendanyi biwe, babakorera ibara, barabica.

7Uwo mwami araraka, ashuhura ingabo ziwe, ahonya abo bicanyi, ayigiza igisagara cabo.

8Maze abwira abagendanyi biwe ati: "Ubukwe burateguwe, ariko ababutorewe ntibari babukwiye.

9Nuko ni mugende mu mayirabiri, abo muribuboneyo bose mubahamagare, baze babutahe."

10Abo bagendanyi baragenda baja mu nzira bakoranya abo babonye bose, ababi n'abeza; mu bukwe huzura abatowe.

11Umwami yinjiye kuraba abatowe abonamwo umuntu atambaye impuzu y'ubukwe;

12aramubaza ati: "Mugenzi wanje, winjiye ute hano utambaye impuzu y'ubukwe?"Uno nawe arajorerwa.

13Maze umwami abwira abakozi biwe ati: "Ni mumubohe amaboko n'amaguru, mumuterere hanze mu mwiza;"ni ho hazoba amarira n'ukuryanya insya z'amenyo.

14Kuko abatowe ari benshi, ariko abatoranijwe bakaba bake.

15Buno Abafarisayo baragenda baja inama, ngo baronke ingene bomutegera mu majambo yovuga.

16Bamutumako abigishwa babo hamwe n'abantu ba Herode bati: "Mwigisha, turazi yuko uri umunyakuri, kandi ko wigisha inzira y'Imana vy'ukuri, kandi ko udatinya umuntu n'umwe ku kigohe; kuko udatinya ijunja ry'abantu.

17None utubwire, wiyumvira ute? Biremerwa gutanga ikori rya Kayisari, canke ntivyemerwa?"

18Ariko Yesu amenya ububi bwabo, arababaza ati: "Mungereza iki ga mwa ndyarya mwe?

19Ni munyereke ifaranga ritangwako ikori." Bamuzanira idenariyo.

20Arababaza ati: "Iki gishushanyo n'ibi vyanditsweko ni ivya nde?"

© 2007 Bible Society of Burundi.

21Bati: "Ni ivya Kayisari." Buno arababwira ati: "Nuko rero ivya Kayisari ni mubihe
Kayisari, ivyo Imana mubihe Imana." “

22Bavyumvise baratangara, bamusigaho barigira.

23Nya musi Abasadukayo bahakana yuko ata kuzuka kuriho baza kuri we,
baramubaza

24bati:" "Mwigisha, Mose yavuze ngo umuntu ni yapfa adasize abana, mwene nyina
acure umugore wiwe, ngo ahonore mwene nyina.”

25I wacu hari abavukana indwi. Uwa mbere yararongoye, arapfa, maze kuko adasize
umwana, umugore wiwe amuraga mwene nyina.

26Nuko n'uwa kabiri, n'uwa gatatu biba bityo gushitsa ku w'indwi.

27Hanyuma ya bose nya mugore arapfa.

28None mw'izuka azoba muka nde muri abo uko ari indwi? Ko bari bamufise bose!

29Yesu arabishura ati: "Mwarazimiye, ko mutamenye ivyanditswe n'ubushobozi
bw'Imana.”

30Mw'izuka ntibazorongora kandi ntibazoshingirwa; bazoba nk'abamarayika bo
mw'ijuru.

31Ariko ivyo kuzuka kw'abapfuye nta ho murasoma ico Imana yababwiye

32ko ari Mana ya Aburahamu, Imana ya Isaka, Imana ya Yakobo? Imana si iyo
abapfuye, ni iyo abariho." “

33Ishengero rivyumvise, ritangazwa n'inyigisho ziwe.

34Abafarisayo bumvise ko Yesu yatangaje Abasadukayo, bakoranira hamwe.

35Umwe muri bo w'umwigisha w'ivyagezwe aramubaza amugeza

36ati:" "Mwigisha, ibwirizwa risumba ayandi mu vyagezwe ni irihe?”

37Aramwishura ati: "Mukundishe Uhoraho Imana yanyu imitima yanyu yose
n'ubugingo bwanyu bwose n'ubwenge bwanyu bwose.

38Iryo ni ryo rihambaye rya mbere.

39Hari irindi rya kabiri rimeze nka ryo, ni iri: Mukunde abavukanyi banyu nk'uko
mwikunda.

40Kuri ayo mabwirizwa yompi ivyagezwe vyose n'amajambo y'abavugishwa n' Imana
ni yo bifatiyeko.”

41Abafarisayo bagikoraniye hamwe, Yesu arababaza

42ati: "Ivya Kristo muvyiyumvira mute?" Ni mwene nde? Baramwishura bati: "Ni
umwana wa Dawidi.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

43Na we arababaza ati: "None Dawidi mu vya Mpwemu yamwitiye iki Umwami ?"

44ati: "Uhoraho yabariye Umwami wanje Ati: ' Icara i buryo bwanje, Ushitse aho nzoshirira abansi bawe musi y'ibirenge vyawe.'"

45None Dawidi ko yamwise Umwami, yoshobora ate kuba umwana wiwe?

46Ntihagira uwushobora kumwishura ijambo na rimwe, kandi uhereye kuri uwo musi nta muntu yubahutse gusubira kumubaza ikindi.

## Matayo 23

1Maze Yesu abarira ishengero n'abigishwa biwe

2ati: "Abahinga b'ivyanditswe n'Abafarisayo bafise ububasha bwo gusobanura amabwirizwa ya Mose."

3Nuko ivyo bababwira vyose mubikore, muvyitondere. Ariko ntimukurikire ibikorwa vyabo, kuko ivyo bavuga atari vyo bakora.

4Kandi batekera imitwaro iremereye igoye itwara, bakayikoreza abantu ku bitugu, ariko ubwabo ntibagomba kuyikozako n'urutoke.

5Ariko ibikorwa vyabo vyose babikora kugira ngo barabwe n'abantu, kuko amambe yabo yanditswemwo amajambo y'Imana bayagira manini, ubuyonga bw'impuzu zaho bakabwongereza.

6Bakunda ivyicaro vyo haruguru aho batumiwe, n'intebe z'icubahiro mu nsengero z'Abayuda,

7no kugirwako bwakeye mu bibanza vy'ihuriro, no kwitwa n'abantu: Rabi.

8None, ntimukitwe Mwigisha, kuko umwigisha wanyu ari umwe, namwe mwese muri abavukana.

9Kandi ntimukite umuntu wo mw'isi Data, kuko So ari umwe, ari uwo mw'ijuru.

10Kandi ntimukiyite muranzi, kuko umuranzi wanyu ari umwe, ari Kristo.

11Ariko umukuru muri mwebwe azobe umukozi wanyu.

12Uwuzokwishira hejuru azocishwa bugufi, kandi uwuzokwicisha bugufi azoshirwa hejuru.

13Muzobona ibara, mwebwe abahinga b'ivyanditswe n'Abafarisayo, mwa ndyarya mwe, kuko mwugarirana ubwami bwo mw'ijuru imbere y'abantu; kandi ntimubwinjiramwo ubwanyu, n'abagomba kubwinjiramwo ntimubakundira.

[ 14Muzobona ibara, mwebwe abahinga b'ivyanditswe n'Abafarisayo, mwa ndyarya mwe, kuko mukirya ingo z'abapfakazi musengesha menshi muhumba; ni co gituma muzocirwa urubanza ruruta izindi. ]

© 2007 Bible Society of Burundi.

15 Muzobona ibara, mwebwe abahinga b'ivyanditswe n'Abafarisayo, mwa ndyarya mwe, kuko mukwiragira mu kiyaga no ku misozi ngo muhindure n'umwe abe uwo idini yanyu; iyo ahindutse, mutuma abarusha kabiri kuba umwana wa Gehinomu.

16 Muzobona ibara, mwa ndongozi zihumye mwe, muvuga muti: "Uwuzorahira urusengero si ikigoye, ariko uwuzorahira izahabu yo mu rusengero azoba yikwegeye umwenda.”

17 Mwa bipfu n'impumyi mwe, none ni ikihe gihambaye; ni izahabu canke ni urusengero rweza izahabu?

18 Kandi ngo uwuzorahira igicaniro si ikigoye, ariko uwuzorahira ishikanwa ririko azoba yikwegeye umwenda.

19 Mwa mpumyi mwe, none ni ikihe ari gikuru, ni ishikanwa, canke ni igicaniro ceza ishikanwa?

20 Nuko uwurahiye igicaniro aba akirahiranye n'ibiriko vyose,

21 kandi uwurahiye urusengero aba arurahiranye n'Iyirubamwo,

22 kandi uwurahiye ijuru aba arahiye intebe y'Imana n'Iyiyivyagirako.

23 Muzobona ibara, mwebwe abahinga b'ivyanditswe n'Abafarisayo, mwa ndyarya mwe, mutanga icacumi c'imbwija, anisi na kumino, ariko mwaretse ibihambaye vyo mu mabwirizwa, guca izibereye, imbabazi n'ukwizera; ariko ivyo mwari mukwiye kubikora, vya bindi na vyo ntimubireke.

24 Mwa ndongozi zihumye mwe, muramimina agatuku, ariko ingamiya murayiyongobeza.

25 Muzobona ibara, mwebwe abahinga b'ivyanditswe n'Abafarisayo, mwa ndyarya mwe, kuko mwoza igikombe n'inkoko inyuma, ariko imbere vyuzuye ubwambuzi n'ukutigarura.

26 Wa Mufarisayo uhumye we, banza woze imbere mu gikombe no mu nkoko, inyuma havyo na ho habone kwera.

27 Muzobona ibara, mwebwe abahinga b'ivyanditswe n'Abafarisayo, mwa ndyarya mwe, kuko musa n'imva zihomeshejwe ingwa, ziboneka inyuma zisize, ariko imbere zuzuye amagufa y'abapfuye n'ibihumanya vyose.

28 Namwe ni ko muri; inyuma mubonekera abantu muri abagororotsi, ariko imbere mwuzuye uburyarya n'ubugarariji.

29 Muzobona ibara, mwebwe abahinga b'ivyanditswe n'Abafarisayo, mwa ndyarya mwe, kuko mwubakira imva z'abavugishwa n'Imana, mugashariza ivyibutso vy'abagororotsi,

30 mukavuga muti: "Iyo tuba twariho muri ico gihe ca ba sogokuruza, ntitwari gufatanya na bo kuvisha amaraso y'abavugishwa n'Imana.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

31Uko ni ko mwiyagiriza ko muri abana b'abishe abavugishwa n'Imana.

32None ni mwuzurize ingero ya ba sogokuruza banyu.

33Mwa nzoka mwe, mwa bana b'inzoka, muzohunga mute urubanza rwa Gehinomu?

34Ehe ngira ntume abavugishwa n'Imana n'abanyabwenge bo n'abahinga
b'ivyanditswe; bamwe muri bo muzobica, mubabambe, abandi muzobatonagurira mu
masengero y'Abayuda, mubatuza mu bisagara vyose;

35bitayeko muzokorwa n'amaraso yose y'abagororotsi yaviriye kw'isi, uhereye ku
maraso ya Abeli umugororotsi ukageza ku maraso ya Zakariya umwana wa Barakiya
mwiciye hagati y' ahera h'urusengero n'igicaniro.

36Ndababwire ukuri; ivyo vyose bizoshika ku b'iki gihe.

37Ewe Yerusalemu! Ewe Yerusalemu! Wica abavugishwa n' Imana, ugatera amabuye
abagutumweko, ni kangahe nagomvye gukorany'abana bawe, nk'uko inkoko ikoranya
imiswi yayo iyibundikira mu vyubi vyayo, ntimwakunda!

38Raba inzu yanyu muyitanywe ari umusaka.

39Kuko ndababwira yuko mutazosubira kumbona kuva ubu, kugeza aho muzovugira
muti: "Hashemezwe uwuje mw'izina ry'Uhoraho."

## Matayo 24

1Yesu arasohoka ava mu rusengero; akigenda abigishwa biwe baramwegera ngo
bamwereke inyubako y'urusengero.

2Arababwira ati: "Ntimubona ivyo vyose?"Ndababwire ukuri, aha ntihazosigazwa
ibuye rigeretse ku rindi, ridasamburiwe hasi.

3Yicaye ku musozi wa Elayono, abigishwa biwe baramwegera bihereranye,
baramubaza bati: "Tubwire, ivyo bizobaho ryari, kandi ikimenyetso kizoba ikihe
c'ukuza kwawe n'ico umuhero w'isi?”

4Yesu arabishura ati: "Mwirinde, ntihagire uwubazimiza.”

5Kuko benshi bazoza mw'izina ryanje bati: "Ni jewe Kristo,"kandi bazozimiza benshi.

6Muzokwumva intambara n'impuha z'intambara, mwirinde, ntimugahagarike imitima;
kuko bitazobura kubaho, ariko umuhero uzoba utaraza.

7Kuko ihanga rizotera irindi hanga, n'ubwami buzotera ubundi bwami; amapfa no
kunyiganyiga kw'isi bizobaho henshi;

8ariko ivyo vyose ni itanguriro ryo kuramukwa.

9Ni ho bazobatanga ngo muzigirizwe, bazobica, kandi muzokwankwa n'amahanga
yose, abahora izina ryanje.

10Ni ho benshi bizobatsitaza, bazoryarukana, bazokwankana.

© 2007 Bible Society of Burundi.

11Kandi hazokwaduka abigira abavugishwa n'Imana benshi, bazimize benshi.

12Maze kuko ubugarariji buzogwira urukundo rw'abenshi ruzotimba.

13Ariko uwihangana, agashitsa kw'iherezo, ni we azokira.

14Kandi ubu butumwa bwiza bw'ubwami buzovugwa mw'isi yose, ngo bube ikimenyetso kibere icabona amahanga yose, maze umuhero uzoca uza.

15Nuko aho muzobonera ca kizira c'ishano c'ubugesera, gihagaze ahantu hera, cavuzwe na Daniyeli yavugishwa n'Imana- uwusoma ni yiyubare

16ico gihe abazoba bari i Yudaya bazohungire ku misozi miremire,

17uwuzoba ari hejuru ku nzu ntazokwururuka no gusahura ibiri mu nzu yiwe,

18uwuzoba ari mu mirima ntazosubira inyuma no gusahura umutamana wiwe.

19Ariko muri iyo misi abazoba batwaye inda n'abonsa bazobona ibara.

20Kandi muzosenge kugira ngo uguhunga kwanyu ntikuzobe mu gatasi canke kw'isabato.

21Kuko muri iyo misi hazoba amarushwa ahambaye atigeze kubaho kuva kw'itanguriro ry'isi ugashitsa n'ubu, kandi ntazokwongera kubaho.

22Kandi iyo misi iyo itagerurwa ntihorokotse umuntu n'umwe; ariko ku bwo abatoranijwe iyo misi izogerurwa.

23Ico gihe ni hagira umuntu ababwira ati: "Ehe Kristo ari hano,"canke ati: "Ari hariya,"ntimuzovyemere.

24Kuko hazokwaduka abigira Kristo n'abigira abavugishwa n' Imana, bagakora ibimenyetso bihambaye n'ibitangaza, kugira ngo bazimize n'abatoranijwe ni vyashoboka.

25Raba ndabibabwiye bitaraba.

26Nuko ni bababwira bati: "Ehe ari mu bugaragwa,"ntimuzojeyo; canke, ngo ari haruguru mu mpete, ntimuzovyemere.

27Nk'uko umuravyo urabiriza mu buseruko ukabonekera iyo rirengera, ni ko ukuza kw'Umwana w'umuntu kuzomera.

28Aho umuvyimba uri hose, ni ho ibikona bizokoranira.

29Hanyuma y'ayo marushwa y'ico gihe, uwo mwanya izuba rizocura umwiza, n'ukwezi ntikuzoba kucaka umuco wakwo, n'inyenyeri zizokoragurika zive kw'ijuru, n'ivyo inkomezi vyo mu majuru bizonyiganyizwa.

30Buno ikimenyetso c'Umwana w'umuntu kizobonekera kw'ijuru, ni ho amoko yose yo mw'isi azoboroga, bazobona Umwana w'umuntu aje mu bicu vyo kw'ijuru ari n'ububasha n'ubwiza bwinshi.

© 2007 Bible Society of Burundi.

31Azotuma abamarayika biwe n'ijwi rirenga ry'inzumbeti, bakoranye abatoranijwe biwe, bave mu birere bine, guhera iyo ijuru ritangurira kugeza iyo riherera.

32Ni mwigire ku musukoni umugani wawo, ishami ryawo iyo ritoshe, amababi agatutuza, mumenya yuko agatasi kari hafi.

33Nuko namwe, ni mwabona ivyo vyose bishitse, muzomenye ko ari hafi, ku rugi.

34Ndababwire ukuri, abo iki gihe ntibazorangira, ivyo vyose bitarashika.

35Ijuru n'isi bizorangira, ariko amajambo yanje nta co azoba.

36Ariko uwo musi canke iyo saha nta wubizi, n'iyo boba abamarayika bo mw'ijuru, canke Umwana w' Imana, atari Data gusa.

37Kandi uko vyari biri mu misi ya Nowa ni ko bizoba mu kuza kw'Umwana w'umuntu.

38Kuko ari ko bari bameze mu misi umwuzure utaribwatere: bararya, baranywa, bararongora, barashingira, bageza kuri wa musi Nowa yinjiye muri bwa bwato,

39ntibagira ico bamenya kugeza aho umwuzure waziye ubatwara bose; ni ko ukuza kw'Umwana w'umuntu kuzomera.

40Ico gihe abagabo babiri bazoba mu murima, umwe azojanwa, uwundi arekwe.

41Abagore babiri bazoba bariko barasyera hamwe ku rusyo, umwe azojanwa, uwundi arekwe.

42Nuko mwame mugavye, kuko mutazi umusi Umwami wanyu azozako.

43Ariko ibi mubimenye; iyaba nyene urugo yari asanzwe azi igihe igisuma kiziramwo, yogavye, ntiyokunze ko inzu yiwe yimbwa.

44Nuko namwe mwame mwiteguye, kuko Umwana w'umuntu azoza mu gihe mutiyumviriye.

45None ni nde mushumba wo kwizigirwa w'ubwenge shebuja yosigarana abo mu rugo rwiwe, ngo abagaburire igihe kigeze?

46Harahiriwe uwo mushumba shebuja agarutse azosanga akora atyo.

47Ndababwira ukuri yuko azomuha kugaba ivyo afise vyose.

48Ariko umushumba mubi ni yibwira mu mutima wiwe ati: "Databuja aracatevye.”

49Maze agatangura gukubita abashumba bakorana no gusangira n'ababorerwa;

50shebuja w'uwo mushumba azoza ku musi atamwiteze no mu gihe atazi;

51azomuta hanze, amusangize umugabane wiwe n'indyarya, ni ho hazoba amarira no kuryanya insya z'amenyo.

## Matayo 25

© 2007 Bible Society of Burundi.

1Ico gihe ubwami bwo mw'ijuru buzosa n'inkumi icumi, zajanye amatara yazo, zija gusanganira umukwe.

2Batanu muri bo bari ibijuju, bandi batanu bari abanyabwenge.

3Kuko vya bijuju, mu kujana amatara yavyo, bitajananye n'amavuta.

4Ariko abanyabwenge bo, bajananye n'amavuta mu macupa yabo hamwe n'amatara yabo.

5Umukwe agitebaganye bose barahunyiza, barasinzira.

6Mu gicugu humvikana urwamo, ngo nguwu umukwe, ni musohoke mumusanganire.

7Buno za nkumi zose zirazanzamuka, zitunganya amatara yazo.

8Vya bijuju bibwira abanyabwenge biti: "Ni muduhe se ku mavuta yanyu, kuko amatara yacu ariko arazima.”

9Ariko abanyabwenge barabishura bati: "Kumbure ntiyodukwira twese; ivyiza ni muje ku badandaza mwigurire.”

10Bakigiye kugura umukwe arashika; abiteguye binjirana na we mu bukwe, umwango urugarwa.

11Mu nyuma za nkumi zindi na zo ziraza ziti: "Mupfasoni, mupfasoni, ni utwugururire.”

12Na we arabishura ati: "Ndababwire ukuri: Sindabazi.”

13Nuko mwame mugavye kuko mutazi umusi canke isaha.

14Bizoba nk'ivyo umuntu agira agende mu mahanga, ahamagara abantu biwe, abasigarana ivyo atunze.

15Umwe amuha italanto zitanu, uwundi zibiri, uwundi imwe, uko umuntu wese ashobora, aja mu mahanga.

16Uwo mwanya uwahawe italanto zitanu aragenda arazicuruza, yungukamwo izindi talanto zitanu.

17N'uwa zibiri abigenza atyo, yungukamwo izindi zibiri.

18Ariko uwahawe imwe arigira, yimba mu kuzimu, ahisha amahera ya shebuja.

19Hashize igihe kirekire, shebuja w'abo bantu aragaruka, asuzuma ivyo yabasigaranye.

20Uwari yahawe italanto zitanu araza, azana italanto zindi zitanu ati: "Mugenzi, wari wansigaranye italanto zitanu, ehe nungutsemwo izindi talanto zitanu.”

21Shebuja aramubwira ati: "Wagize neza, muntu wanje mwiza wo kwizigirwa, wizigiwe kuri bike, nzoguha kugaba vyinshi. Injira mu munezero wa shobuja." “

© 2007 Bible Society of Burundi.

22 Haza uwari yahawe italanto zibiri ati: "Mugenzi, wari wansigaranye italanto zibiri, ehe nungutsemwo izindi talanto zibiri.”

23 Shebuja aramubwira ati: "Wagize neza, muntu wanje mwiza wo kwizigirwa, wizigiwe kuri bike, nzoguha kugaba vyinshi. Injira mu munezero wa shobuja.”

24 Kandi haza uwahawe italanto imwe ati:"Mugenzi, nari nkuzi ko uri umuntu w'ingare, wimbura ivyo utarimye, ukumakuma ivyo utasanzaje;

25 ndatinya, ndagenda ndahisha italanto yawe mu kuzimu; ehe ngibi ivyawe."“

26 Shebuja aramwishura ati: "Wa muntu wanje mubi we, wa kinebwe we, wari uzi ko nimbura ivyo ntarimye, nkumakuma ivyo ntasanzaje.”

27 Nuko wari ukwiye kujana amahera yanje mu bayacuruza, nanje nagaruka nkaronka ayanje n'inyungu yayo.

28 Nuko ni mumwake italanto, muyihe uwufise italanto icumi.

29 Kuko uwufise wese azohabwa, asesekarizwe; ariko uwudafise azokwakwa n'ico yarafise.

30 N'uwo muntu wanje w'imburakimazi ni mumute hanze mu mwiza, ni ho hazoba amarira no kuryanya insya z'amenyo.

31 Ariko Umwana w'umuntu aho azozira afise ubwiza bwiwe ari kumwe n'abamarayika biwe bose, ni ho azovyagira ku ntebe yiwe y'ubwiza;

32 amahanga yose azokoranirizwa mu nyonga ziwe, na we azobarobanura, nk'uko umwungere arobanura intama mu mpene.

33 Intama azozihererereza i buryo bwiwe, impene na zo i bubamfu.

34 Maze Umwami azobwira abari i buryo bwiwe ati: "Ni muze, abo Data yahezagiye, muragwe ubwami mwateguriwe, uhereye ku kuremwa kw'isi.

35 Nari nshonje, murangaburira, nari mfise inyota, mumpa ico nywa; nari ingenzi, mumpa indaro;

36 nagenda gusa, muranyambika; nari ndwaye, muza kuraba uko meze; nari mw'ibohero, muza kundaba.

37 Maze abagororotsi bazomubaza bati: "Mwana, twakubonye ryari ushonje, tukakugaburira; canke ufise inyota, tuguha ico unywa?

38 Twakubonye ryari uri ingenzi, tuguha indaro; canke ugenda gusa tukakwambika?

39 Twakubonye ryari urwaye, canke uri mw'ibohero, tuza kukuraba?”

40 Umwami na we azobishura ati: "Ndababwire ukuri; ko mwabigiriye umwe muri aba bavukanyi banje bari hanyuma y'abandi, ni jewe mwabigiriye.”

41 Maze azobwira n'abari i bubamfu ati: "Ni mumve i ruhande, mwa bivume mwe, muje mu muriro utazima wateguriwe wa mugarariji n'abamarayika biwe.

© 2007 Bible Society of Burundi.

42Nari nshonje, ntimwangaburira; nari mfise inyota ntimwampa ico nywa;

43nari ingenzi, ntimwampa indaro; nagenda gusa, ntimwanyambika; nari ndwaye, nari mw'ibohero, ntimwaza kundaba.

44Maze na bo bazomwishura bati: "Mwana, twakubonye ryari ushonje, ufise inyota, uri ingenzi, ugenda gusa, urwaye canke uri mw'ibohero, ntitwagira ico tugukorera?”

45Maze azobishura ati: "Ndababwire ukuri; ko mutabigiriye umwe muri aba bari hanyuma y' abandi, nanje ntimwabingiriye.”

46Abo bazoja mu gihano kidashira, ariko abagororotsi bazoja mu bugingo budashira.

## Matayo 26

1Yesu arangije ayo majambo yose, abwira abigishwa biwe

2ati: "Murazi yuko imisi ibiri ni yashira, hazoba Pasika, kandi Umwana w'umuntu azotangwa abambwe.”

3Maze abaherezi bakuru n'abakuru b'ubwo bwoko bakoranira mu rugo rw'umuherezi mukuru yitwa Kayafa,

4baja inama yo guhenda Yesu ngo bamufate, bamwice.

5Ariko bati: "Ntitumufate mu misi mikuru, ntihavyuke umugumuko mu bantu.”

6Yesu ari i Betaniya mu nzu kwa Simoni umunyamibembe,

7umugore aza kuri we afise ikebano ry' amavuta atamirana y'igiciro kinini cane, ayamusuka ku mutwe, ariko ararya.

8Ariko abigishwa babibonye, baritonganya bati: "Mbega ubu buhombe ni ubwo iki?

9Aya yoshoboye kugurwa vyinshi bigahabwa aboro.”

10Yesu avyumvise arababwira ati: "Mubabariza iki uwu mugore? Ankoreye igikorwa ciza.

11Aboro muramana imisi yose, ariko jeho ntituja kwamana imisi yose.

12Igitumye ansukako ayo mavuta ku mubiri ni ukuntegurira guhambwa.

13Ndababwire ukuri, aho ubu butumwa bwiza buzovugwa hose mw'isi yose, n'ico uwu akoze na co kizovugwa kibe icibutso ciwe.”

14Maze umwe muri bamwe icumi na babiri, yitwa Yuda Isikaryota, aja ku baherezi bakuru,

15arababaza ati: "Mwompera iki, nkazomubaronkera?" "Bamugerera intete z'ifeza mirongo itatu.

16Aherako arondera uburyo bwo kumubaronkera.

© 2007 Bible Society of Burundi.

17Ku musi wo gutangurirako kurya imitsima itambiwe abigishwa baza kuri Yesu, baramubaza bati:" "Ugomba ko tugutegurira hehe aho uriburire ivya Pasika?"

18Arabishura ati: "Ni muje mu gisagara kwa ntuze, mumubarire ko umwigisha avuze ngo igihe ciwe kiregereje, 'agira asangirire ivya Pasika n'abigishwa biwe i wawe."

19Abigishwa bagira nk'uko Yesu yababariye, bategura ivya Pasika.

20Bugorovye, yicarana n'abigishwa biwe icumi na babiri ngo basangire.

21Bariko bararya, arababwira ati: "Ndababwira ukuri yuko umwe muri mwebwe agira angurishe."

22Barababara cane, batangura kumubaza umwumwe bati: "Ni jewe ga Mugenzi?"

23Arabishura ati: "Uwo duhuje amaboko mu gukoza mu mubehe, ni we angurisha."

24Umwana w'umuntu agira agende, nk'uko vyanditswe kuri we; ariko uwo muntu agurisha Umwana w'umuntu azobona ibara; uwo muntu ivyomubereye vyiza iyaba atavutse.

25Yuda amugurisha aramubaza ati: "Ni jewe ga Mwigisha?" Na we ati: "Ni wewe uvyivugiye."

26Bariko bararya, Yesu yakira umutsima, awuhezagiye arawumanyagura, awuha abigishwa ati: "Ni mwakire, murye, uwu ni umubiri wanje."

27Yakira igikombe, agishimira Imana, arakibaha ati: "Ni mukinywereko mwese,

28kuko iki ari amaraso yanje y'isezerano, aviriye benshi ngo baharirwe ivyaha.

29Ariko ndababwira yuko uhereye none ntazokwongera kunywa kuri izi nzabibu ugashitsa kuri wa musi nzosangirira namwe umutobe wazo musha mu bwami bwa Data."

30Bahejeje kuririmba, barasohoka baja ku musozi wa Elayono.

31Maze Yesu arababwira ati: "Mwebwe mwese muri iri joro ivyanje bihava bibatsitaza; kuko handitswe, ngo Nzokubita umwungere, intama z'umukuku zisanzare."

32Ariko ni namara kuzurwa, nzobitangira imbere kuja i Galilaya.

33Maze Petero aramwishura ati: "Ivyawe naho vyotsitaza bose, jeho nta ho bizontsitaza."

34Yesu aramubwira ati: "Ndakubwira ukuri yuko muri iri joro inkoko itarabika, uhava unyihakana gatatu."

35Petero aramubwira ati: "Naho noba nkwiye gupfana nawe, sinokwihakana." N'abigishwa bose bavuga batyo.

36Maze Yesu ashikana na bo ahantu hitwa i Getsemane, abwira abigishwa biwe ati: "Ba muricaye hano, mbanze nje harya gusenga."

© 2007 Bible Society of Burundi.

37Ajana Petero n'abana ba Zebedayo bompi, atangura kubabara no guhagarika umutima cane.

38Arababwira ati: "Umutima wanje uri n'akabonge kagomba kunyica, ba muragumye aha, mubane maso nanje.”

39Yunguruza imbere gatoya, arubama, arasenga ati: "Data, asangwa vyoshoboka, iki gikombe ni kindengane; ariko ntibibe uko jewe ngomba, yamara bibe uko wewe ugomba.”

40Agaruka ku bigishwa, asanga basinziriye, abaza Petero ati: "Ubwo ntimurushe mubana maso nanje n'isaha n'imwe?

41Ni mube maso, musenge, ntimuje mu mosha mabi. Umutima ni wo ukunze, ariko umubiri ufise intege nke.”

42Yongera kugenda ubwa kabiri, arasenga ati: "Data, asangwa bidashoboka yuko iki kindengana, kiretse ndakinywereyeko, ni bibe nk'uko ugomba.”

43Yongera kugaruka asanga basinziriye, kuko amaso yabo yari aremerewe.

44Yongera kubasigaho, aragenda, asenga ubwa gatatu, avuga amajambo nk'amwe ya mbere.

45Maze agaruka ku bigishwa, arababarira ati: "Ni mwisinzirire noneho, muruhuke. Ehe igihe kirashitse, Umwana w'umuntu ashizwe mu maboko y'abanyavyaha.

46Ni muvyuke, tugende, ehe uwungurishije ari hafi.”

47Akivuga, Yuda, umwe muri bamwe icumi na babiri, araza, azananye n'igitero cinshi, kizanye inkota n'amahiri, kivuye ku baherezi bakuru n'abashingantahe b'ubwo bwoko.

48Ariko uwumugura yari yabahaye ikimenyetso ati: "Uwo nja gusoma azoba ari we; mumufate.”

49Ako kanya Yuda ashikira Yesu, aramubwira ati: "Ni amahoro ga Mwigisha?" Maze aramusomagura.

50Yesu aramubarira ati: "Mugenzi wanje, ikikuzanye ni ugikore." Buno baraza, bashorera amaboko kuri Yesu, baramufata.

51Maze umwe mu bari kumwe na Yesu atuma ukuboko, asokora inkota yiwe, ayikubita umushumba w'umuherezi mukuru, amuca ugutwi.

52Buno Yesu aramubarira ati: "Subiza inkota yawe ahayo; kuko ababanguye inkota bose bazokwicwa n'inkota.”

53Ugira ngo sinoshobora kwinginga Data, na we akandungikira ubu nyene abamarayika barega legiyono icumi na zibiri?

54None ivyanditswe vyoshika bite ko ari ko bikwiye kuba?

© 2007 Bible Society of Burundi.

55Uwo mwanya Yesu abaza ico gitero ati: "Mbega muje kumfata nk'umwambuzi, muzanye inkota n'amahiri? Ko nicara mu rusengero nigisha imisi yose ntimumfate?"

56Ariko ivyo vyose bibaye, kugira ngo ivyanditswe n'abavugishwa n'Imana bishike. " Buno abigishwa bose baramuta, barahunga.

57Abafashe Yesu bamujanye kwa Kayafa, umuherezi mukuru, ni ho abahinga b'ivyanditswe n'abashingantahe bari bakoraniye.

58Ariko Petero amuja inyuma barenga arenguka, gushitsa ku rugo rw'umuherezi mukuru, ashika imbere, yicarana n'abagendanyi ngo arabe amaherezo.

59Abaherezi bakuru n'abashingantahe b'amasentare bose baronderera Yesu ibirego vy'ibinyoma, ngo babone ingene bomwica.

60Ariko barabibura, naho haje abigize ivyabona benshi. Ubuheruka haza babiri

61bati:" "Uwo yagize ngo yoshobora gusambura urusengero rw'Imana, akarwubaka mu misi itatu."

62Umuherezi mukuru arahaguruka, aramubaza ati: "Nta co wiregura? Aba bakwagirije iki?"

63Ariko Yesu arihorera. Umuherezi mukuru aramubwira ati: "Ndakurahiye Imana nzima, tubarire ko ari wewe Kristo, Umwana w'Imana."

64Yesu aramwishura ati: "Uravyivugiye; yamara ndababwira yuko uhereye ubu muzobona Umwana w'umuntu yicaye i buryo bw'Ububasha, aje mu bicu vyo kw'ijuru."

65Buno umuherezi mukuru yitabagurirako impuzu ziwe ati: "Ararogose; turacaronderera iki ivyabona? Ehe muriyumviye ingene arogose;

66mubivuga kw'iki?" Na bo baramwishura ko akwiye gupfa.

67Buno bamuvuma amate mu maso, bamukubita ibipfunsi, abandi baramubingura

68bati: "Yewe Kristo, dupfindure, ni nde agukubise?"

69Ariko Petero yari yicaye hanze mu rugo. Incoreke iza aho ari iti: "Nawe nyene mwari kumwe na Yesu Umunyagalilaya."

70Na we abihakanira mu maso ya bose ati: "Ico uvuze sindanakizi."

71Yungururije mu bikingi vy'irembo, iyindi ncoreke iramubona, ibarira abari aho iti: "N'uwu nyene yari kumwe na Yesu Umunyanazareti."

72Yongera kubihakana arahira ati: "Uwo muntu sindanamuzi."

73Hahise akanya, abahagazeho baramwegera, babwira Petero bati: "Ni ivyo ukuri nawe uri uwo muri bo; bitayeko n'imvugo yawe iraguhinyuza."

74Buno atangura kurahira arisiba ati: "Uwo muntu sindanamuzi." Uwo mwanya inkoko irabika;

© 2007 Bible Society of Burundi.

75Petero yibuka ijambo Yesu yamubwiye ati: "Inkoko itarabika uja kunyihakana gatatu." Arenga irembo, araturika ararira.

## Matayo 27

1Umutwenzi utambitse abaherezi bakuru bose n'abashingantahe b'ubwo bwoko bagira inama Yesu ngo bamwice.

2Baramuboha baramujana, bamushikiriza Pilato, icegera ca Kayisari.

3Maze Yuda yamugurishije, abonye Yesu ko bamutsindishije, aricuza, asubiza abaherezi bakuru n'abashingantahe za ntete z'ifeza mirongo itatu

4ati: "Nacumuye, naguze amaraso y'uwutagira icaha." Na bo baramwishura bati: "Bidutwaye iki? Ni ivyawe.”

5Aterera izo ntete z'ifeza ahera h'urusengero, aragenda, arimanika.

6Abaherezi bakuru bandura zino feza bati: "Ntizemerwa gushirwa mu mashikanwa, kuko ari ibiguze amaraso.”

7Baja inama, bazigura ubwatsi ku mubumvyi, ngo bazohahambe ingenzi.

8Ni co catumye ubwo bwatsi bwitwa "Ubwatsi bw'amaraso", gushika n'ubu.

9Ni ho ivyavuzwe na Yeremiya yavugishwa n'Imana vyashikiye, ngo bakiriye za ntete z'ifeza mirongo itatu, ni zo giciro yaciriwe, uwo bamwe mu Bisirayeli baciriye,

10bazigura ubwatsi n'umubumvyi, nk'uko Uhoraho yambariye.

11Ariko Yesu yari ahagaze mu maso ya ca cegera ca Kayisari; ico cegera kiramubaza kiti: "Ni wewe Mwami w'Abayuda?" Yesu aramwishura ati: "Uravyivugiye.”

12Ariko mu vyo arezwe n'abaherezi bakuru n'abashingantahe ntiyishura na rimwe.

13Pilato aramubaza ati: "Ntiwumva ingene bakwagiriza vyinshi?”

14Ariko ntiyamwishura n'ijambo na rimwe, bituma ico cegera gitangara cane.

15Muri iyo misi mikuru icegera camenyereye kurekurira abantu imbohe imwe, iyo bagomba.

16Kandi bari n'imbohe imwe yari rurangiranwa yitwa Baraba.

17Bakoranye, Pilato arababaza ati: "Uwo mugomba ko ndabarekurira ni nde?" Ni Baraba, canke ni Yesu yitwa Kristo?

18Kuko yamenye yuko ishari ari ryo rimubatangishije.

19Acicaye ku ntebe y'imanza umugore wiwe amutumako ati: "Ntihagire ico ugira uwo mugororotsi; kuko naraye ndose mbona mbabazwa vyinshi kubwiwe.”

20Ariko abaherezi bakuru n'abashingantahe bosha ishengero ngo rimusabe Baraba, ryicishe Yesu.

© 2007 Bible Society of Burundi.

21Ico cegera kirababaza kiti: "Muri abo bompi uwo mugomba ko ndabarekurira ni nde?" Na bo baramwishura bati: "Ni Baraba.”

22Pilato arababaza ati: "None Yesu yitwa Kristo, we ndamugire nte?" Bose bati: "Ni abambwe.”

23Arababaza ati: "Ni kuki? Yakoze ikibi ki ?" Ariko barushiriza gusemerera cane bati: "Ni abambwe.”

24Maze Pilato abonye ko arushwa n'ubusa, ariko ko barushirije kuvyura umugumuko, yakira amazi akarabira imbere y'ishengero ati: "Jeho ndacuna kubwo amaraso y'uwu mugororotsi, ni ivyanyu.”

25Abantu bose baramwishura bati: "Amaraso yiwe araba ari twebwe akora n'abana bacu." “

26Maze abarekurira Baraba, ariko Yesu aramutonagura, amutanga ngo abambwe.

27Maze abasoda b'ico cegera ca Kayisari bajana Yesu mu gisagara gikikijwe n'uruhome rw'amabuye, bateraniriza ingabo zose kuri we.

28Bamwambura impuzu ziwe, bamwambika umutamana w'agahama,

29batsiba igitsibo c'amahwa, bakimwambika mu mutwe, bashira n'irenga mu kuryo kwiwe; baramupfukamira, baramucurira bati:" "Ndagize bwakeye Mwami w'Abayuda !”

30Bamuvuma amate, bamushikura rya renga, barimukubita mu mutwe. “

31Bamaze kumwitamba ku muvyimba, bamwambura wa mutamana, bamwambika impuzu ziwe, bamujana kumubamba.

32Bakirenga irembo bahura n'Umunyakurene yitwa Simoni, uwo baramufata kugira ngo amutwaze umusaraba.

33Bashitse ahantu hitwa i Gologota, risobanurwa ngo ahantu h' agahanga,

34bamuha umuvinyu uvanze n'umuti w'umururazi, ngo awunywe; awumvirije yanka kuwunywa.”

35Bamaze kumubamba, bagabura impuzu ziwe, bakoresheje ubupfindo,

36bicara hano baramurinda.

37Hejuru y'umutwe wiwe bahashira ikirego ciwe, canditswe ngo uwu NI YESU, UMWAMI W'ABAYUDA.

38Maze bamubambana n'abambuzi babiri, umwe i buryo, uwundi i bubamfu.

39Abahahita baramutuka, bazunguza imitwe

40bati: "Wewe usambura urusengero, ukarwubaka mu misi itatu, ni wikize, ni waba uri Umwana w'Imana imanure ku musaraba.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

41N' abaherezi bakuru, abahinga b'ivyanditswe n'abashingantahe bamucurira batyo na bo

42bati: "Yakijije abandi, we ntashobora kwikiza. Ni Umwami w'Abisirayeli, ni yimanure ku musaraba ubu nyene, duheze tumwizere.

43Yizigiye Imana, ni imukize ubu nyene ni yaba imubabaye: kuko yigira ngo ni Umwana w'Imana." “

44N' abambuzi babambanywe na we na bo barabimutuka.

45Uhereye kw'isaha ya gatandatu ubwirakabiri bukorana mu gihugu cose gushitsa kw'isaha y'icenda.

46Nko kw'isaha y'icenda Yesu asemerera n'ijwi rirenga ati:" "Eli, Eli, lama sabakatani?" Risobanurwa ngo, "Mana yanje, Mana yanje, ni igiki kikumpebesheje?”

47Bamwe mu bahahagaze bavyumvise, baravuga bati: "Uwo ahamagaye Eliya.”

48Umwe muri bo aca arirukanga yakira sipongo, ayuzuza inkarisha ayirungikisha irenga, arayimusomesha.

49Ariko abandi bati: "Banza ureke, turabe ko Eliya yoza kumukiza.”

50Yesu yongera gusemerera n'ijwi rirenga, umutima uraca.

51Igitambara gikingiriye ahera cane h'urusengero gitabukamwo kubiri, uhereye hejuru ugashitsa hasi; isi iratigita; ibitandara birasaduka;

52imva ziruguruka, imivyimba myinshi y'abera bari basinziriye irazurwa;

53bava mu mva amaze kuzuka, bashika mu gisagara cera, babonekera benshi.

54Intwazangabo z'abasoda ijana n'abari kumwe na we barinda Yesu, babonye isi itigita n'ibibaye, baratinya cane bati: "Ni ivyo ukuri, yari Umwana w'Imana.”

55Hariho n'abagore benshi bari kure babiraba; ni bo bakurikiye Yesu ava i Galilaya, bamukorera.

56Muri bo harimwo Mariya Magadalene na Mariya nyina wa Yakobo na Yose, na nyina w'abana ba Zebedayo. “

57Ariko bugorovye haza umutunzi w'i Arimataya yitwa Yosefu, kandi na we yari umwigishwa wa Yesu;

58uwo aja kuri Pilato asaba ikiziga ca Yesu. Maze Pilato avuga ko bakimuha.

59Yosefu ajana ico kiziga, akizingira mu mpuzu yera nziza,

60agishira mu mva yiwe nshasha, yari yarimbishije mu bitandara; atembagaza ikibuye kinini acugaza umuryango w'imva, aragenda.

61Mariya Magadalene na Mariya wundi ni ho bari bari, bicaye berekeye ku mva.

© 2007 Bible Society of Burundi.

62Bukeye bwaho, ni wo musi wakurikira uwo Kwitegura, abaherezi bakuru
n'Abafarisayo bakoranira kwa Pilato,

63baramubwira bati:" "Mugenzi, twibutse yuko wa muhumvyi akiriho yagize ngo
imisi itatu ishize azozuka.”

64Nuko ni ugere barinde imva cane gushitsa ku musi ugira gatatu, kugira ngo
abigishwa biwe ntibaze kumwiba, bakabwira abantu ngo yazutse mu bapfuye; maze
ubuhumvyi bwa nyuma bworuta ubwa mbere.

65Pilato arababwira ati: "Abarinzi ngabo, ni mubajane; muyirindishirize uko muzi.”

66Nuko baragenda barindisha imva, ca kibuye bagihomako ishashara, bayidomamwo
ikimenyetso, abo barinzi babona.

## Matayo 28

1Umusi w'isabato ushize, ku wa mbere w'imisi indwi, umutwenzi ugomba gutambika,
Mariya Magadalene na Mariya wundi baja kuraba imva.

2Habaho kunyiganyiga kw'isi gukomeye, kuko umumarayika w' Umwami Imana yari
amanutse ava mw'ijuru, araza akura ca kibuye agitembagaje, acicarako.

3Ishusho yiwe yasa n'umuravyo, impuzu ziwe zera nk'ipampa.

4Ubwoba yateye abararirizi bubashira mu gatengo, bamera nk' abapfuye.

5Ariko umumarayika abwira ba bagore ati: "Mweho ntimutinye, kuko nzi ko
murondera Yesu, umwe yabambwa;

6ntari hano, kuko yazutse, nk'uko yavuze. Ngo murabe aho umwami yari aryamye.

7Ni mukwakwanye mubwire abigishwa biwe yuko yazutse mu bapfuye, kandi
azobitangira imbere kuja i Galilaya, iyo ni ho muzomubonera. Nuko ni ivyo,
ndabibabwiye.”

8Bava ku mva ningoga, bari n'ubwoba n'akanyamuneza kenshi, birukanga kubibwira
abigishwa biwe.

9Maze Yesu ahura na bo ati: "Ni amahoro." Baramwegera, bamufata ku birenge,
baramusenga.

10Maze Yesu arababwira ati: "Ntimutinye; ni mugende mubwire abavukanyi banje
ngo baje i Galilaya, ni ho tuzobonanira.”

11Bakigenda, bamwe muri ba barinzi baja mu gisagara, babwira abaherezi bakuru
ivyabaye vyose.

12Na bo bakoranira hamwe n'abashingantahe baja inama, bahera abo basoda amahera
menshi

13bati: "Muzovuge ko abigishwa biwe baje mw'ijoro, baramutwiba dusinziriye.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

14Icegera ca Kayisari ni caramuka kivyumvise, tuzomuhwamika, namwe tuzobakiza amagorwa. “

15Bakira ya mahera, bagira nk'uko bohejwe; kandi iryo jambo ryandagara mu Bayuda gushika n'ubu.

16Maze ba bigishwa icumi n'umwe baja i Galilaya ku musozi Yesu yabarangiye;

17bamubonye, baramusenga, ariko bamwe barakekeranya.

18Yesu arabegera, arababwira ati:" "Jewe nahawe ububasha bwose mw'ijuru no mw'isi.”

19Nuko ni mugende, muhindure amahanga yose abigishwa, mubabatiza mw'izina rya Data wa twese n'iryo Umwana n'irya Mpwemu Yera;

20mubigishe kwitondera ivyo nabageze vyose. Umve, ndi kumwe namwe imisi yose, gushitsa ku muhero w'isi.

© 2007 Bible Society of Burundi.

# Mariko

## Mariko 1

1 Itanguriro ry'ubutumwa bwiza bwa Yesu Kristo, Umwana w'Imana.

2 Nk'uko vyanditswe na Yesaya yavugishwa n'Imana, " Ngo Umve, ngira ntume intumwa yanje imbere y'amaso yawe, Ikuroranirize inzira.

3 Ijwi ry'uwusemererera mu bugaragwa Ati:"Ni mutegure inzira y' Uhoraho, Mugorore izo ibihamo ziwe."

4 Ni ko Yohana yaje, abatiriza mu bugaragwa, yigisha ukubatizwa kwo kwihana, ngo babohorwe ivyaha.

5 Igihugu c'i Yudaya cose n'abo i Yerusalemu bose bava i wabo, baza kuri we, ababatiriza mu ruzi Yorodani, batuye ivyaha vyabo.

6 Kandi Yohana yambara ubwoya bw'ingamiya, akabukenyeza umukaba w'urusato mu rukenyerero, kandi yarya inzige n'ubuki bwo mw'ishamba.

7 Yaravuga ati: "Uwundusha ubushobozi azoza mu nyuma yanje, ntibimbereye no kwunama ngo mpfundurure utugozi tw'ibirato vyiwe.

8 Jeho ndababatirishije amazi, ariko we azobabatirisha Mpwemu Yera."

9 Muri iyo misi Yesu ava i Nazareti i Galilaya, araza, abatizwa na Yohana muri Yorodani.

10 Avuye mu mazi, aca abona ijuru rirugurutse, Mpwemu aramanuka amugwako, asa n'inuma.

11 Ijwi riva mw'ijuru riti: "Ni wewe Mwana wanje nkunda ukampimbara." "

12 Mpwemu aca amushorera mu bugaragwa.

13 Amarayo imisi mirongo ine, ageragezwa na Satani; kandi yaba hamwe n'ibikoko, abamarayika bakamukorera.

14 Yohana amaze gushirwa mw'ibohero, Yesu aja i Galilaya, ababwira ubutumwa bwiza bw' Imana

15 ati:" "Igihe kirashitse, ubwami bw'Imana buri hafi; mwihane, mwemere ubutumwa bwiza."

16 Aciye i ruhande y'ikiyaga c'i Galilaya, abona Simoni na Andereya mwene nyina baterera urusenga mu kiyaga, kuko bari abarovyi.

17 Yesu arababarira ati: "Ni munkurikire, nzobagira abaroba abantu." "

18 Baca bareka insenga, baramukurikira.

19 Yigiye imbere gato, abona Yakobo umwana wa Zebedayo na Yohana mwene nyina, na bo bari mu bwato basanura insenga.

© 2007 Bible Society of Burundi.

20Aca arabahamagara, basiga se Zebedayo mu bwato hamwe n'abakozi biwe, baramukurikira.

21Bashika i Kaperinawumu, aca yinjira mu rusengero rw'Abayuda kw'isabato, arabigisha.

22Batangazwa n'inyigisho ziwe, kuko yabigisha nk'uwufise ububasha, ntase n'abahinga b'ivyanditswe.

23Uwo mwanya mu rusengero rw'Abayuda hari umuntu yinjiwemwo n'impwemu ihumanye, arasemerera

24ati:" "Duhuriye hehe ga Yesu Munyanazareti? Uje kuduhonya? Ndakuzi uwo uri we, uri Uwera w'Imana."

25Yesu aramuzibiza ati: "Hora, muvemwo."

26Iyo mpwemu ihumanye iramujegeza, irasemerera, ivuga n'ijwi rirenga, imuvamwo.

27Bose baratangara, bituma babazanya bati: "Iki ni iki?" Ni ukwigisha gusha!" " Ni ububasha ategeka n'impwemu zihumanye na zo, zikamwumvira." "

28Inkuru yiwe ica ikwira hose mu gihugu cose c'i Galilaya kihakikije.

29Bavuye mu rusengero rw'Abayuda, baca bajana na Yakobo na Yohana mu nzu kwa Simoni na Andereya.

30Kandi inabukwe wa Simoni yari aryamye, afashwe n'umururumbo, baca bamubarira ivyiwe.

31Yesu araza, amufata ukuboko, aramuvyutsa, umururumbo urazima, arabazimana." "

32Ku kagoroba, ku kirengazuba, bamuzanira abarwaye bose n'abinjiwemwo n'abadayimoni.

33Igisagara cose gikoranira kw'irembo.

34Akiza benshi bari barwaye indwara zitandukanye, asenda abadayimoni benshi, ntiyakundira abo badayimoni ko bavuga, kuko bari bamuzi.

35Mw'ijoro rishira ubuca aravyuka, arasohoka, aja mu gahinga, asengerayo.

36Simoni n'abandi bari kumwe na we baramukurikira;

37bamubonye baramubwira bati:" "Bose bariko barakurondera."

38Arabishura ati: "Tuje ahandi mu bisagara biri hafi, na ho nyene nigisheyo, kuko ari co canzanye."

39Yinjira mu masengero y'Abayuda i Galilaya hose, avuga ijambo ry'Imana, asenda abadayimoni.

40Haza umunyamibembe kuri we, amwinginga amupfukamiye ati: "Ukunze, woshobora kumpumanura."

© 2007 Bible Society of Burundi.

41Amugirira akagongwe, agorora ukuboko, amukorako ati: "Ndakunze, humanuka.”

42Imibembe ica imuvako, arakira.

43Aramwihanikiriza rwose, aca amurungika uwo mwanya,

44aramubarira ati: "Wirinde, ntugire uwo ubikerukiriza, ariko genda, wiyereke umuherezi, utange ivyo uguhumanurwa kwawe, nk'uko Mose yageze, bibe ikimenyetso kibabere icabona.”

45Maze avaho, atangura kwandagaza no gukwiza ivyabaye; ni co catumye Yesu atabaye agishobora kuja mu gisagara abandi babizi, ariko aguma inyuma yaco mu mihana; abava hose baza kuri we.

## Mariko 2

1Hashize imisi, asubira i Kaperinawumu, bimenyekana ko ari mu nzu.

2Benshi bakoraniraho, ntibakwirwa mu nzu, eka n'imbere y'umuryango hose; ababwira ijambo ry'Imana.

3Haza abazanye ikimuga, bagiteruye ari bane.

4Babuze ingene bamushikira ku bwo ishengero, basambura inzu hejuru y'aho atumbereye; bahejeje kuhatobora, bururukirizamwo inderuzo, iryamyemwo ico kimuga.

5Yesu abonye ukwizera kwabo, abwira ico kimuga ati:" "Mwana wanje, ivyaha vyawe urabihariwe.”

6Ariko hariho abahinga b'ivyanditswe bamwe bicayeho, biburanya mu mitima

7bati: "Ni igiki gitumye uwo avuga atyo? Aratyojeje, ni nde ashobora guharira ivyaha, atari umwe, ni we Mana?”

8Yesu amenye mu mutima wiwe yuko biburanya muri bo batyo, aca arababaza ati: "Ni igiki gitumye mwiburanya ivyo mu mitima yanyu?”

9Icoroshe ni ikihe, ni ukubarira ikimuga nti: "Uhariwe ivyaha vyawe; canke ni ukukibarira nti: ' Vyuka, wikorere inderuzo yawe, ugende?'“

10Ariko kugira ngo mumenye ko Umwana w'umuntu afise ububasha mw'isi bwo guharira ivyaha-abwira ikimuga

11ati: "Ndakubariye nti: ' Vyuka, wikorere inderuzo yawe, utahe.'“

12Aravyuka, aca yikorera inderuzo, asohoka imbere ya bose. Nuko bose barumirwa, bahimbaza Imana bati: "Ntitwaribwabone bene ibi.”

13Arasohoka, yongera kuja i ruhande y'ikiyaga; ishengero ryose riza kuri we, arabigisha.

© 2007 Bible Society of Burundi.

14 Nuko ariko aragenda abona Lewi umwana wa Alufayo, yicaye aho yatoreza ikori, aramubarira ati: "Nkurikira." Ava hasi, aramukurikira.

15 Kandi yicaye mu nzu y'uwo, ariko ararya, haza benshi mu batozakori n'abanyavyaha basangira na Yesu n'abigishwa biwe; bari benshi, kandi baramukurikira.

16 Abahinga b'ivyanditswe bo mu Bafarisayo babonye asangira n'abanyavyaha n'abatozakori babwira abigishwa biwe bati: "Mbega ko asangira n'abatozakori n'abanyavyaha!”

17 Yesu avyumvise, arababwira ati: "Abakomeye nta co bagombera umuvuzi, atari abarwaye. Sinaje guhamagara abagororotsi, atari abanyavyaha.”

18 Kandi abigishwa ba Yohana bo n'Abafarisayo bari bisonzesheje. Baraza, baramubaza bati: "Ni igiki gituma abigishwa ba Yohana n'abigishwa b'Abafarisayo bisonzesha, abigishwa bawe ntibisonzeshe?”

19 Yesu arababaza ati: "Mbega abatowe bokwisonzesha bate, bakiri kumwe n'umukwe? Umukwe akiri kumwe na bo ntibashobora kwisonzesha.

20 Hari imisi izoza, umukwe akurwe muri bo, bazoca bisonzesha uwo musi.

21 Nta wobarira ikiraka c'igitambara gishasha ku mpuzu y'umushire; kuko ico kiremo coyitabura, igisha kikavana n'umushire, ikarushiriza gutabuka.

22 Kandi nta wotara umutobe w'umuvinyu mu mikuza y'insato ibombotse; kuko umuvinyu woturitsa iyo mikuza, umuvinyu n'imikuza bigapfana. Ariko umutobe w'umuvinyu bawutara mu mikuza mishasha.”

23 Kandi kw'isabato, agenda aca mu mirima y'ingano; abigishwa biwe bakigenda batangura kumyoza ingano.

24 Abafarisayo baramubaza bati: "Ni igiki gitumye bakora ikizira gukorwa kw'isabato?”

25 Na we arababaza ati: "Nta ho murasoma ico Dawidi yakoze, aho yari aburaniwe ashonje, bo n'abari kumwe na we?”

26 Ingene yinjiye mu nzu y'Imana, mu misi ya Abiyatari umuherezi mukuru, akarya imitsima yagenewe gushikanirwa Imana, ari umuziro kuribwa, ukuye abaherezi, akayihako n'abari kumwe na we?”

27 Kandi arababwira ati: "Isabato yabayeho ku bwo umuntu, ariko umuntu si we yabayeho ku bwo isabato.

28 Ni co gituma Umwana w'umuntu ari umwami w'isabato na yo."

## Mariko 3

1 Yongera kwinjira mu rusengero rw'Abayuda; kandi hari umuntu anyunyutse ukuboko;

© 2007 Bible Society of Burundi.

2baramugenza ngo barabe ko amukiza kw'isabato, ngo bamurege.

3Abarira uwo muntu anyunyutse ukuboko ati: "Va hasi, uhagarare hagati."

4Arababaza ati: "Mbega ivyemerwa ni ugukora ivyiza kw'isabato canke ni ugukora ibibi? Gukiza umuntu canke kumwica?" " Barihorera.

5Aberaguzamwo amaso, aratse, ababazwa n'uko imitima yabo ikomantaye, abarira uwo muntu ku gorora ukuboko kwiwe. Arakugorora, kurakira.

6Abafarisayo barasohoka, baja hamwe n'abantu ba Herode baca bamugira inama ngo babone ingene bomwica.

7Maze Yesu n'abigishwa biwe bavayo, baja ku kiyaga. Ishengero ryinshi riramukurikira, bavuye i Galilaya, i Yudaya,

8i Yerusalemu, muri Idumaya, hakurya ya Yorodani, abahereranye, no muri Tiro n'i Sidoni, ishengero ryinshi ryumvise ivyo yakoze riza kuri we."

9Abarira abigishwa biwe ngo bagumishe ubwato butoya hafi ku bwo ishengero, ngo ntirimubande.

10Kuko yakijije benshi, ni co catumye abari bafise ivyago bose bamuhenukirako, ngo bamukoreko.

11Impwemu zihumanye na zo uko zimubonye zamwikubita imbere, zigasemerera ziti: "Uri Umwana w'Imana." "

12Arazihanikiriza cane, ngo ntizigende ziramwandagaza.

13Maze aduga umusozi muremure, ahamagara abo agomba, baza kuri we.

14Atoranya icumi na babiri bo kubana na we, maze ngo abatume kwigisha,

15no kugira ububasha bwo kwirukana abadayimoni.

16Nuko atoranya aba icumi na babiri: Simoni, amwita Petero;

17atoranya Yakobo umwana wa Zebedayo na Yohana mwene nyina wa Yakobo, na bo abita Bowanerige, risobanurwa ngo abana b'inkuba;

18atoranya Andereya, Filipo, Barutolomayo, Matayo, Toma, Yakobo umwana wa Alufayo, Tadayo, Simoni Umunyakananayo

19na Yuda Isikaryota, ni we yamuguze.

20Hanyuma Yesu aja mu nzu, ishengero ryongera gukoranira kuri we, bituma babura ingene botamira n'agatsima.

21Abo i wabo bavyumvise barasohoka ngo baje kumufata, kuko bagira ngo Yasaze.

22Kandi abahinga b'ivyanditswe bavuye i Yerusalemu baravuga bati:" "Arimwo Beyezebuli:" kandi bati: "Umukuru w'abadayimoni ni we amushoboza kwirukana abadayimoni."

© 2007 Bible Society of Burundi.

23Arabahamagara, abacira umugani ati: "Satani yoshobora ate kwirukana Satani?"

24Ubwami iyo bwitandukanije ubwabwo, ubwo bwami ntibushobora kurama.

25Inzu ni yitandukanya ubwayo, iyo nzu ntizoshobora kurama.

26Kandi Satani, namba yihagurukiye, akitandukanya, ntashobora guhangama, arahera.

27Kandi nta muntu yoshobora kwinjira mu nzu y'umuntu w'inkomezi kumusahura ibintu, atabanje kuboha wa munyenkomezi, maze akabona kumusahura ivyo mu nzu yiwe.

28Ndababwire ukuri, abana b'abantu bazoharirwa ivyaha vyabo vyose n'ibityozano vyose bazotyoza,

29ariko umuntu wese azotyoza Mpwemu Yera nta ho azoharirwa, kandi azoba akoze icaha c'ibihe bidashira.

30Icatumye avuga atyo ni uko bavuze ngo arimwo impwemu ihumanye.

31Maze nyina n'abavukanyi biwe baraza, batuma kumuhamagara, bahagaze hanze.

32Ishengero ryari ryicaye rimukikije; maze baramubwira bati: "Erega umuvyeyi wawe na barumuna bawe bari hanze, barakurondera."

33Na we arababaza ati: "Mama ni nde, canke bene mama ni ba nde?"

34Yeraguza amaso abari bicaye impande zose bamukikije ati: "Ngaba mama na bene mama;

35umuntu wese akora ivyo Imana igomba ni we murumunanje, ni we mushikanje, ni we mama."

## Mariko 4

1Atangura ukundi gushasha kwigishiriza ku nkombe y'ikiyaga. Ishengero ryinshi cane rikoranira kuri we, bimutera gutambukira mu bwato buri mu kiyaga, yicaramwo, ishengero ryose riguma ku nkombe y'ikiyaga.

2Abigisha vyinshi mu migani, ababwira muri ukwo kwigisha kwiwe

3ati: "Ni mwumve; umubivyi yasohoye imbuto.

4Akibiba, zimwe zigwa i ruhande y'inzira; inyoni ziraza, zirazinobagura.

5Izindi zigwa ku rutare, hatari ivu ryinshi; zica zimera vuba, kuko ata vu ryinshi ririho;

6izuba rirashe, ziraraba, kuko ata mizi zifise, ziruma.

7Izindi zigwa mu mahwa, amahwa arakura, arazinyoha, ntizama.

8Izindi zigwa mw'ivu ryiza, ziramera, zirakura, zihunda impeke, zimwe mirongo itatu, izindi mirongo itandatu, izindi ijana, bityobityo."

© 2007 Bible Society of Burundi.

9Kandi ati: "Uri n'amatwi yumva, ni yumve."

10Biherereye, abari kumwe na we na bamwe icumi na babiri bamubaza iyo migani;

11arabishura ati: "Mwebwe mwahawe ibanga ry'ubwami bw'Imana, ariko abo hanze babarirwa vyose mu migani;

12ngo kuraba barabe, yamara ntibavyitegereze; kwumva bavyumve, yamara ntibabitahure; ngo kumbure bohindukira bagaharirwa."

13Kandi arababaza ati: "Ntimuzi uwo mugani? none imigani yose muzoyitahura mute?

14Umubivyi abiba ijambo ry'Imana.

15Abo i ruhande y'inzira, aho iryo jambo ribibwa, iyo bahejeje kwumva, Satani aca aza uwo mwanya, akabakuramwo iryo jambo ryabibwe muri bo.

16N' aba ni uko, ni bo babibwe ku rutare; iyo bumvise iryo jambo, baca baryakirana umunezero,

17ntibagire imizi muri bo, ariko bahagarara umwanya muto, maze iyo badutsweko n'amarushwa bo n'akadenderezo bazira iryo jambo, bica bibagwisha.

18Abandi ni bo babibwe mu mahwa, abo ni bo bumva iryo jambo,

19maze umwitwaririko w'ivyo isi n'uruhendo rw'ubutunzi no kwifuza ibindi, iyo bibinjiyemwo, binyoha iryo jambo, rikaba imbuto.

20Ababibwe mw'ivu ryiza, abo ni bo bumva iryo jambo bakaryemera, bagahunda impeke, umwe mirongo itatu, uwundi mirongo itandatu, uwundi ijana, bityobityo.

21Kandi arababaza ati: "Mbega itara rizanwa ngo baryubikeko igiseke canke barishire mu rutara, ntirishirwa ku gitereko caryo?

22Kuko ata canyegejwe kitazoserurwa, canke icagizwe ibanga kitazoja ahabona.

23Uwuri n'amatwi yumva, ni yumve."

24Kandi arababarira ati: "Mwiyubare mu vyo mwumva. Ingero mugeramwo ni yo muzogererwamwo, kandi muzorengerezwa;

25kuko uwufise azohabwa, ariko uwudafise azokwakwa n'ico yari asanzwe afise."

26Yongera kubabwira ati: "Ubwami bw'Imana busa n'umuntu yabivye imbuto mw'ivu,

27bwije agasinzira, bugaca akavyuka, imbuto zikamera, zigakura, atazi ingene zakuze.

28Ivu rimeza ryonyene, habanza kuba ibironge, hanyuma hakaba imiyange, hanyuma hakaba imishi itengengeye impeke.

29Maze imirima yeze, aca ayitemesha umuhoro, kuko igihe c'ishwabura kigeze."

30Kandi arababaza ati: "Ubwami bw'Imana tubushushanye ni iki? Canke tubusobanurishe umugani ki?

© 2007 Bible Society of Burundi.

31Busa n'akabuto k'igiti, iyo gatewe mw'ivu, naho ari kanzinya hanyuma y'imbuto zose ziri mw'isi;

32ariko iyo gatewe, karakura, kakaba kanini, kakaruta ibirimwa vyose, kagashamika amashami manini, kandi inyoni zo mu kirere zishobora kwarika ivyari mu gitutu cako.”

33Kandi ababwira ijambo ry'Imana mu migani myinshi imwe n'iyo, uko bashobora kwumva.

34Kandi atabaciriye umugani nta co yababwira, ariko yihereranye n'abigishwa biwe akabibasobanurira vyose.

35Kuri uwo musi bugorovye, arababwira ati: "Tujabuke tuje hakurya.”

36Basiga abantu hano, bamujana mu bwato yahozemwo, kandi ayandi mato yari kumwe na bo.

37Nuko haza inkubi ikomeye y'umuyaga, imipfunda yisuka mu bwato, bwariko buruzura.

38Ariko we yari aryamye mu mutwe w'inyuma, yiseguye umusego yisinziriye. Baramukangura, baramubaza bati: "Mwigisha, ntubabaye ko turiko turapfa?”

39Arikangura, azibiza ingunza, abarira ikiyaga ati: "Hora, utekereze." Umuyaga uraca, haba agahwekere rwose.

40Arababaza ati: "Ni igiki kibateye ubwoba? Ntimurizera?”

41Baratinya, bagira ubwoba bwinshi, barabazanya bati: "Mbega uwu ni umuntu ki, umuyaga n'ikiyaga ko bimwumvira?"

## Mariko 5

1Bafata hakurya y'ikiyaga mu gihugu c'Abageraseni.

2Avuye mu bwato, umuntu yinjiwemwo n'impwemu ihumanye ava mu masenga y'imva, aca aramusanganira.

3Yaba muri ayo masenga, ntihagira uwuba akibona ico ashobora kumubohesha, n'iyo woba umunyororo;

4kuko bamuboheshe je iminyororo ku maguru no ku maboko kenshi, iyo amaboko akayicagagura, iyo amaguru akayivutagura. Ntihagira umuntu afise inkomezi zomustinda.

5Maze imisi yose ku murango no mw'ijoro yama muri ayo masenga no ku misozi, ataka, yikebesha amabuye.

6Abonye Yesu akiri kure, arirukanga, arunama,

7asemerera n'ijwi rirenga ati: "Duhuriye hehe ga Yesu Mwana w'Imana Isumbavyose? Ndakurahiye Imana, ntubabaze ushinyagurira.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

8Kuko yari amubariye ati: "Va mu muntu, wa mpwemu ihumanye.”

9Aramubaza ati: "Witwa nde?" Aramwishura ati: "Gitero ni ryo zina ryanje kuko turi benshi.”

10Aramwinginga cane ngo ntazirukane muri ico gihugu.

11Kandi kuri uwo musozi hari ubusho bwinshi bw'ingurube zirisha;

12izo mpwemu mbi ziramwinginga ziti: "Turungike muri ziriya ngurube, tuzinjiremwo.”

13Arazemerera. Izo mpwemu zihumanye zimusokorotsemwo, zinjira muri nya ngurube, umukuku wirukira ku gatembwe, zisuka mu kiyaga, zari nk'ibihumbi bibiri, amazi araziniga.

14Abaziragira barahunga, babivuga mu gisagara no mu misozi; na bo baza kuraba ibibaye ivyo ari vyo.

15Bashika aho Yesu ari, basanga uwari yinjiwemwo n'abadayimoni yicaye, yambaye, ubwenge bwagarutse, umwe nyene yari yinjiwemwo na ca gitero; baratinya.

16Ababibonye babadondera ivyo uwari yinjiwemwo n'abadayimoni n'ivyo ingurube.

17Batangura kwinginga Yesu ngo ave mu ntara yabo.

18Ariko aratambukira mu bwato, uwari yinjiwemwo n'abadayimoni aramwinginga ngo agume kuri we.

19Ntiyamukundira, ariko aramubarira ati: "Ja i muhira i wawe mu b'i wanyu, ubabarire ivyo Umwami Imana igukoreye vyose, kandi ingene ikugiriye ikigongwe." “

20Aragenda, atangura gukwiza i Dekapoli ivyo Yesu yamukoreye vyose, abantu bose baratangara.

21Nuko Yesu agenda mu bwato, asubira hakurya, ishengero ryinshi rikoranira kuri we; yari i ruhande y'ikiyaga.

22Haza umwe mu bakuru b'isengero ry'Abayuda, yitwa Yayiro, amubonye amwitembagaza imbere y'ibirenge,

23aramwinginga cane ati:" "Akana kanje k'agakobwa kari ku mpfiro, ndakwinginze, ni uze se, umurambikeko ibiganza, akire, abeho.”

24Aragenda, ajana na we. Ishengero ryinshi riramukurikira rimubanda.

25Kandi umugore atakaza amaraso menshi yari abimaranye imyaka icumi n'ibiri,

26yababajwe cane n'abavuzi benshi bamumarisha ibintu vyiwe vyose abitangamwo ingemu, ntihagira ico bamumarira, mbere arushiriza kurwara;

27yumvise ivya Yesu, araza, aca hagati y'ishengero, amuturuka inyuma, akora ku mpuzu yiwe.

© 2007 Bible Society of Burundi.

28Yari yibwiye ati: "N'iyo nokora ku mpuzu ziwe gusa, nokira.”

29Uwo mwanya isoko y'amaraso irakama, amenya mu mubiri wiwe yuko akize ico
cago.

30Ako kanya Yesu yumva muri we ubushobozi bumuvamwo, ahindukira abandana
n'ishengero, arababaza ati: "Ni nde akoze ku mpuzu zanje?”

31Abigishwa biwe baramwishura bati: "Ubone abantu bariko barakubanda, nawe
ukagira ngo ni nde ankozeko?”

32Aberaguzamwo amaso, ngo abone uwumukozeko.

33Uwo mugore aratinya, ahinda agashitsi, kuko azi ikimubayeko, araza amwikubita
imbere, amubarira ivyo ukuri vyose.

34Yesu aramubwira ati: "Mwana wanje, ukwizera kwawe kuragukijije, genda
amahoro, ukire rwose icago cawe.”

35Akivuga, haza abavuye kwa wa mukuru w'isengero ry'Abayuda bati: "Wa mwana
wawe aracikanye, uracagorerera iki Umwigisha?”

36Ariko Yesu ntiyashira umutima kw'ijambo rivuzwe, abarira uwo mukuru w'isengero
ry'Abayuda ati: "Ntutinye, wizere gusa.”

37Ntiyakundira uwundi muntu kujana na we, atari Petero, Yakobo na Yohana mwene
nyina wa Yakobo.

38Bashitse ku nzu y'uwo mukuru w'isengero ry'Abayuda, asanga bariko barakoma
induru barira baboroga cane.

39Yinjiye arababaza ati: "Ni igiki gitumye mukoma induru murira? Umwana
ntahwereye, ariko arasinziriye.

40Baramutwenga bamushimanga. Arabakumira bose, ajana se w'umwana na nyina
n'abari kumwe na we, yigira haruguru aho ikiziga kiri,

41afata ukuboko kw'ikiziga, arakibarira ati: "Talisa kumi;" bisobanurwa ngo
Gakobwa, ndakubariye nti: "Vyuka.”

42Umukobwa aca avyuka uwo mwanya, aragendagenda, kuko yari amaze imyaka
icumi n'ibiri avutse: baca baratangara cane.

43Arabihanikiriza cane, ngo ntihagire umuntu n'umwe abimenya, arababarira ngo
bamugaburire.

## Mariko 6

1Avayo, aja mu ntara y'i wabo, abigishwa biwe baramukurikira.

2Isabato ishitse, aca yigishiriza mu rusengero rw'Abayuda. Benshi bamwumvise
baratangara bati: "Ivyo vyose uwu yabikuye hehe?" Kandi n'ubwenge ki yahawe,
n'ivyo bitangaza bingana bityo bikorwa n'amaboko yiwe ni ibiki?

© 2007 Bible Society of Burundi.

3Mbega si wa mubaji, umwana wa Mariya, mwene nyina wa Yakobo na Yose, Yuda na Simoni? Bashiki biwe na bo ntibari hano i wacu? Ivyiwe birabatsitaza.

4Yesu arababwira ati: "Umuntu avugishwa n'Imana ntagawa ahandi, atari mu ntara y'i wabo, no mu muryango w'i wabo, no mu nzu y'i wabo." “

5Maze ntiyashobora gukorerayo igitangaza na kimwe, atari abarwaye bake yarambitseko ibiganza akabakiza.

6Atangazwa n'ukutizera kwabo. Agendagenda mu mihana ihakikije, yigisha.”

7Ahamagara bamwe icumi na babiri, atangura kubatuma babiribabiri, abaha ububasha ku mpwemu zihumanye.

8Ababuza ngo ntibagire ico bajana ku nzira, atari inkoni gusa ati: "Ntimujane induhuro canke isaho canke amahera mu mipfuko yanyu,

9ariko mwambare ibirato, kandi ntimwambare amapfundo abiri.”

10Kandi arababwira ati: "Inzu yose muzokwinjiramwo, mube ari yo mugumamwo, kugeza aho muzovira aho hantu.”

11Ahantu hose aho bazokwanka kubakira ntibabumvirize, mukivayo muzokunkumure umukungugu wo mu birenge vyanyu, kibe ikimenyetso kibabere icabona.”

12Baragenda, bigisha ko abantu bakwiye kwihana.

13Basenda abadayimoni benshi, basiga amavuta abarwaye benshi, barakira.

14Umwami Herode aravyumva, kuko izina rya Yesu ryari ribaye rurangiranwa, aravuga ati: "Yohana Umubatizi yazutse mu bapfuye, ni co gituma ivyo bitangaza bikorera muri we.”

15Ariko abandi baravuga bati: "Ni Eliya;" abandi bati: "Ni umuntu avugishwa n'Imana, nka ba bandi bavugishwa na yo.”

16Ariko Herode avyumvise, aravuga ati: "Yohana uwo naciye izosi ni we yazutse.”

17Kuko Herode ubwiwe ari we yari yatumye ngo bafate Yohana, aramuboha, amushira mw'ibohero, kubwa Herodiya mwene se umugore wa Filipo, kuko Herode yamucuye.

18Kandi Yohana yari yarabwiye Herode ati: "Ni ikizira ko ufise muka mwene so.”

19Ni co catumye Herodiya amugirira akazika, agomba kumwica, ntiyaronka uburyo;

20kuko Herode yatinya Yohana, amuzi ko agororotse kandi ari umuntu yera, aramukingira; iyo amwumvise hose, ivyiwe vyaramuzazanira, yamara yanezererwa kumwumva.

21Maze umusi uragera, uburyo buraboneka; wari umusi wo kwibutsa ukuvuka kwa Herode; atumira abaganwa biwe, n'abakuru b'intwazangabo z'abasoda, n'abapfasoni b'i Galilaya, ngo baze abatereke.

© 2007 Bible Society of Burundi.

22Umukobwa wa Herodiya nyene arinjira aratamba, Herode n'abashitsi biwe baramushima. Umwami abwira uwo mukobwa ati: "Nsaba ico ugomba cose, ndakiguha."

23Aramurahira ati: "Ico unsaba cose ndakiguha, n'iyo coba igisate c'ubwami bwanje."

24Arasohoka, abaza nyina ati: "Nsabe iki?" Aramwishura ati: "Saba umutwe wa Yohana Umubatizi."

25Aca aza aho umwami ari ningoga, aramusaba ati: "Ndagomba ko umpa nonaha umutwe wa Yohana Umubatizi ku mubehe." "

26Umwami arababara cane, ariko kubwa za ndahiro ziwe, no ku bwo abasangira na we, bimunanira kuwumwima.

27Uwo mwanya umwami atuma uwucungera irembo, amubarira kuzana umutwe wa Yohana. Aragenda, amucira izosi mw'ibohero,

28azana umutwe wiwe ku kibehe, awuha wa mwigeme, na we awuha nyina.

29Abigishwa biwe bavyumvise baraza, bajana ikiziga ciwe, bagihamba mu cobo.

30Nuko za ntumwa zikoranira aho Yesu ari, zimudondera ivyo zakoze vyose n'ivyo zigishije.

31Arababwira ati:" "Ni muze mwebwe mwenyene ahiherereye mu gahinga, muruhuke gatoya." Kuko hari uruja n'uruza, babura n'ingene botamira utwo kurya.

32Bagenda mu bwato, baja ahantu h'agahinga kwihererayo.

33Bababona bagenda, benshi barabamenya, bava mu bisagara vyose, barirukanga, bajana inkokoro y'ikiyaga, babatangayo.

34Yesu avuye mu bwato, abona ishengero ryinshi, rimutera akagongwe kuko bameze nk'intama zitagira umwungere; atangura kubigisha vyinshi.

35Buriko burira, abigishwa biwe baramwegera bati: "Mbega hano hantu ko ari mu gahinga, bukaba buhaye burira;

36basezere, baje mu misozi no mu mihana impande zose, kwirondererayo ivyo kurya."

37Arabishura ati: "Mube ari mwebwe mubagaburira." Baramubaza bati: "Tugende tugure imitsima y'idenariyo amajana abiri, tuyibahe ga barye?"

38Na we arababaza ati: "Mufise imitsima ingahe?" Ni mugende muyirabe. Babimenye baramwishura bati: "Ni dutanu, n'udufi tubiri."

39Ababarira ko bose bicara ku vyatsi bibisi bari mu mirwi.

40Bicara imirongo imirongo, hamwe ijanijana ahandi mirongo itanitanu, batyo batyo.

41Yakira ya mitsima itanu na za fi zibiri, ararangamiza, araba mw'ijuru, arabihezagira, amanyagura iyo mitsima, ayiha abigishwa ngo bayishire imbere y'abantu, n'ifi zompi na zo arazibagaburira bose.

© 2007 Bible Society of Burundi.

42Bararya bose barahaga.

43Begeranya utumanyagu tw'imitsima n'utw'ifi, twuzura ibiseke icumi na bibiri.

44Abariye iyo mitsima bari abagabo ibihumbi bitanu.

45Uwo mwanya Yesu agobera abigishwa biwe ngo batambukire mu bwato, batangure kujabuka hakurya i Betsayida, aheze gusezera rya shengero.

46Ahejeje gusezerana na bo avayo, aduga umusozi gusenga.

47Bwagorovye, bwa bwato bushitse mw'ibenga, ariko we yari i musozi wenyene.

48Abonye ko batamijwe no gusoza, kuko umuyaga wari ubaturutse imbere, ku muteramyi agira kane aza aho bari, agendesha amaguru hejuru ku kiyaga, yagira abarengane.

49Ariko babonye agendesha amaguru hejuru ku kiyaga, bagira ngo ni igihume, bakoma induru y'ubwoba.

50Bose baramubona, basimbwa n'umutima. Ariko uwo mwanya arabavugisha ati: "Humura ni jewe, ni mureke gutinya."

51Aratambuka, aja mu bwato barimwo; umuyaga uraca. Barumirwa cane mu mitima yabo;

52kuko batatahuye ivya ya mitsima, ariko imitima yabo yari ikomantaye.

53Bamaze kujabuka hakurya, bagenda mu misozi mu ntara y'i Genesareti, bazirika ubwato ku nkombe.

54Bavuye mu bwato, abaho baca baramumenya.

55Birukanga impande zose muri ico gihugu cose, batangura guterura abarwaye mu nderuzo, babakwiragirana aho bamwumvise hose.

56Kandi aho yaja, mu mihana, mu bisagara canke mu misozi, bashira abarwaye mu tuguriro, bakamwinginga ngo bamukore naho hoba ku buyonga bw'impuzu yiwe gusa; abamukozeko bose bagakira.

## Mariko 7

1Abafarisayo bakoranira kuri we n'abahinga b'ivyanditswe bamwe bavuye i Yerusalemu.

2Babona abigishwa biwe bamwe barisha ivyo kurya intoke zihumanye, bisobanurwa ngo zidakaravye.

3Ariko Abafarisayo n'Abayuda bose, iyo batifyikinyuye mu gukaraba ntibarya, kuko bakurikiye imigenzo babwirijwe n'aba kera.

© 2007 Bible Society of Burundi.

4Kandi bavuye mu kaguriro, iyo batimijagiye amazi ntibarya, kandi hariho ibindi vyinshi babwirijwe n'aba kera ngo bavyumireko, nko kwoza mu buryo bwinshi ibikombe, inzavya n'inkono zikozwe mu miringa.

5Abafarisayo n'abahinga b'ivyanditswe baramubaza bati: "Ni igiki gitumye abigishwa bawe badakurikira ingeso twabwirijwe n'aba kera, bagapfa kurisha ivyo kurya intoke zihumanye?"

6Arabishura ati: "Yesaya yavuze neza ivyo yavugishijwe n'Imana kuri mwebwe indyarya, nk'uko handitswe, ngo aba bantu banyubahisha iminwa yabo, Ariko imitima yabo iri kure yanje."

7Bansengera ubusa, Kuko inyigisho bigisha ari ivyagezwe n'abantu.

8Ico Imana yageze murakireka ngo mwumire ku migenzo mwabwirijwe n'abantu.

9Kandi ati: "Nka ko mwagize neza gukengera icagezwe c'Imana, ngo muziririze iyo migenzo yanyu !"

10Kuko Mose yavuze ati: "Wubahe so na nyoko:" kandi ati: "Uwututse se canke nyina, ntazobure kwicwa."

11Ariko mweho mugira ngo umuntu ni yabwira se canke nyina ati: 'Ico nari kugufashisha ni Korubani, risobanurwa ngo Ni co nzoshikanira Imana;'

12ntimuba mukimukundira kugira ico yofasha se canke nyina;

13ijambo ry'Imana mukarirituza imigenzo yanyu mwigishije: kandi mukora n'ibindi vyinshi bene ivyo."

14Kandi yongera guhamagara ishengero, araribarira ati: "Munyumve mwese, mubitahure:

15nta kintu kiri inyuma, iyo kigiye imbere mu muntu gishobora kumuhumanya, ariko ibivuye mu muntu ni vyo bimuhumanya."

[ 16Namba hari uwufise amatwi yumva, ni yumve. ]

17Yinjiye mu nzu asize ishengero hanze, abigishwa biwe bamusiguza uwo mugani.

18Na we arababaza ati: "Mbega namwe muri imburabwenge mutyo? Ntimutahura yuko ata kintu kiri inyuma iyo kigiye imbere mu muntu gishobora kumuhumanya,

19kuko kitagiye mu mutima wiwe, ariko kija mu nda, kigaca mu nzira yaco?" Ivyo yabivugiye guhumanura ivyo kurya vyose.

20Kandi aravuga ati: "Ibiva imbere mu muntu, ni vyo bimuhumanya,

21kuko imbere mu mitima y'abantu havamwo ivyiyumviro bibi, ubushakanyi,

22ubwivyi, ubwicanyi, ubusambanyi, ukwifuza, kugira nabi, ubugunge, ivyo isoni nke, ijisho ribi, ibitutsi, ubwibone, ubupfu.

23Ivyo bibi vyose biva imbere ni vyo bihumanya umuntu."

© 2007 Bible Society of Burundi.

24Ava aho hantu, aja mu ntara yo muri Tiro n'i Sidoni. Yinjira mu nzu atagomba ko hogira umuntu abimenya, ariko ntiyashobora kuyoberana.

25Ariko uwo mwanya, umugore afise akigeme kinjiwemwo n'impwemu ihumanye, amwumvise, araza, yikubita imbere y'ibirenge vyiwe.

26Uwo mugore yari Umugirikikazi, amamo yiwe n'i Sirofoyinike, aramwinginga ngo yirukane dayimoni mu mukobwa wiwe.

27Aramubwira ati: "Reka abana babanze guhaga, kuko atari vyiza kwakira umutsima w'abana ukawuterera utubwa."

28Na we Aramwishura ati: "Nka ko, Mugenzi, utubwa na two turi musi y'imeza twirira utuvunguka tw'abana."

29Aramubwira ati: "Ko uvuze utyo ni wigire, dayimoni avuye mu mukobwa wawe."

30Arigira, ashitse mu nzu yiwe asanga umwana aryamye ku buriri, dayimoni amuvuyemwo.

31Yongera kuva mu ntara yo muri Tiro, araza aca i Sidoni, ashika ku kiyaga c'i Galilaya, aciye hagati y'intara y'i Dekapoli.

32Bamuzanira igipfamatwi kidatobora neza, baramwinginga ngo akirambikeko ikiganza.

33Agikura mw'ishengero, aracihererana, agishira intoke mu matwi, acira amate, agikora ku rurimi.

34Ararangamiza, araba mw'ijuru, yitsa umutima, arakibarira ati: "Efata," risobanurwa ngo " Zibuka."

35Amatwi yiwe arazibuka, inkingi z'ururimi rwiwe zirabohoka, avuga neza.

36Arabihanikiriza ngo ntihagire umuntu babibarira, ariko iyo abihanikirije barushiriza gukwiza inkuru yiwe rwose.

37Baratangara cane, baravuga bati: "Akoze vyose neza, azibura n'ibipfamatwi, kandi avugisha ibiragi."

## Mariko 8

1Muri iyo misi hongera kuba ishengero ryinshi, babura ivyo kurya; ahamagara abigishwa, arababarira

2ati: "Ishengero rinteye akagongwe, kuko uwu ari umusi ugira gatatu turi kumwe, none ntibagira ico barya.

3Nobasezera ngo basubire i wabo bashonje, bogwira isari mu nzira, kandi bamwe ari aba kure."

4Abigishwa biwe baramubaza bati: "Umuntu yokura hehe imitsima yo guhaza aba bantu, ko hano ari mu bugararwa?"

© 2007 Bible Society of Burundi.

5Arababaza ati: "Mufise imitsima ingahe?" Na bo bati: "Ni indwi." “

6Abarira ishengero ngo ryicare hasi; yakira ya mitsima indwi, ayishimira Imana, arayimanyagura, ayihereza abigishwa biwe, ngo bayibagaburire; bayigaburira ishengero.

7Kandi bari bafise udufi duke; araduhezagira, avuga ko batubagaburira na two.

8Bararya, barahaga, begeranya utumanyagu tw'imisigazwa, twuzura ibiseke indwi.

9Bari nk'ibihumbi bine; arabasezera.

10Uwo mwanya atambukira mu bwato, bo n'abigishwa biwe, aja ahegereye i Dalamanuta.

11Haza Abafarisayo, batangura kumuhaririza, bamuronderako ikimenyetso kiva mw'ijuru, bamugeza.

12Aruhutsa umutima cane ati:" "Ni igiki gitumye abo iki gihe barondera ikimenyetso? Ndababwira ukuri abo iki gihe bakazohabwa ikimenyetso!”

13Abasiga hano, yongera gutambukira mu bwato, ajabuka hakurya.

14Kandi bari bibagiye gutekera imitsima, nta yo bari bafise mu bwato, atari irobe rimwe.

15Arabihanikiriza ati: "Mumenye, mwirinde umwambiro w'Abafarisayo n'umwambiro wa Herode.”

16Baravugana bati: "Ntidufise imitsima.”

17Yesu arabimenya, arababaza ati: "Ni igiki gitumye mwiburanya ngo nta mitsima mufise?" Ntimuraruha mubimenya canke mubitahura? Mbega mufise imitima ikomantaye?

18Amaso ko muyafise ntimuruha mubona? Mufise amatwi, ntimwumva, kandi ntimwibuka?

19Hamwe namanyagurira ya mitsima itanu ibihumbi bitanu, mwegeranije ibiseke bingahe vyuzuye utumanyagu?" Baramwishura bati: "Ni icumi na bibiri.”

20Kandi hamwe namanyagurira ya mitsima indwi ibihumbi bine, mwatororokanije ibiseke bingahe vyuzuye utumanyagu? Baramwishura bati: "Ni indwi.”

21Arababaza ati: "Ntimuraruha mubitahura?”

22Baraza bashika i Betsayida. Bamuzanira impumyi, baramwinginga ngo ayikoreko.

23Afata iyo mpumyi ukuboko, ayikura mu mihana, acira amate mu maso yayo, ayirambikako ibiganza, arayibaza ati: "Hari ico ubona?”

24Iraramura amaso, iramwishura iti: "Ndabona abantu kuko mbona ibisa n'ibiti bigendagenda.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

25Yongera kurambika ibiganza ku maso yayo, iritegereza, irakira, yihweza vyose neza.

26Amurungika i we ati: "Ntuje no muri iyi mihana.”

27Yesu avanayo n'abigishwa biwe, aja mu mihana y'i Kayisariya mu bwa Filipo. Bari mu nzira, abaza abigishwa biwe ati: "Abantu bagira ngo ndi nde?”

28Baramwishura bati: "Bagira ngo uri Yohana Umubatizi, abandi ngo uri Eliya," " abandi ngo uri umwe mu bavugishwa n' Imana.”

29Na we arababaza ati: "Ariko mweho mugira ngo ndi nde?" Petero aramwishura ati: "Uri Kristo.”

30Arabihanikiriza ngo ntihagire umuntu babwira ivyiwe.

31Atangura kubigisha ati: "Umwana w'umuntu akwiye kuzobabazwa uburyo bwinshi, no kuzokwankwa n'abashingantahe, abakuru b'abaherezi, abahinga b'ivyanditswe, no kuzokwicwa, maze hashize imisi itatu akazuka.”

32Avuga iryo jambo ataguhishangiza. Petero aramwihererana, atangura kumwamira.

33Arahindukira, abona abigishwa biwe, akankamira Petero ati: "Herera inyuma yanje, Satani, kuko ivyo Imana atari vyo ubabaye, ariko ni ivyo abantu.”

34Ahamagara ishengero bo n'abigishwa biwe, arababwira ati: "Umuntu ni yagomba kunkurikira, ni yiyanke, yikorere umusaraba wiwe, ankurikire;

35kuko uwugomba gukiza ubugingo bwiwe azobubura, ariko uwuzoheba ubugingo bwiwe kubwanje no ku bugingo bwo ubutumwa bwiza, azobukiza.”

36Kandi umuntu vyomumarira iki kwunguka ivyo mw'isi vyose, abitangiye ubugingo bwiwe ko iciru?

37Mbega umuntu yotanga iki ngo acungure ubugingo bwiwe?

38Kuko umuntu wese bizotera isoni kunyemera no kwemera amajambo yanje muri iki gihe c'ubusambanyi kandi c'ikinyavyaha, n'Umwana w'umuntu bizomutera isoni kumwemera, aho azozira afise ubwiza bwa Se, azananye n'abamarayika bera.

## Mariko 9

1Arababwira ati: "Ndababwira ukuri; muri aba bahagaze hano harimwo bamwe batazobona urupfu gushitsa aho bazobonera ubwami bw'Imana buzananye n'ubushobozi.”

2Imisi itandatu ishize, Yesu ajana Petero, Yakobo na Yohana, abadugana igisozi kirekire ari bonyene. Ahinduka ukundi imbere yabo,

3impuzu ziwe zirakayangana, zera derere, kandi nta mumesuzi kw'isi yoshoboye kuzeza atyo.

4Maze Eliya na Mose barabiyereka, bavugana na Yesu.

© 2007 Bible Society of Burundi.

5Petero abwira Yesu ati: "Mwigisha, bitubereye vyiza ko turi hano, nuko duce uburaro butatu, bumwe rwawe, ubundi bwa Mose, ubundi bwa Eliya."

6Ntiyari azi ico akwiye kuvuga, kuko bari baguye igihumura.

7Maze igicu kiraza kibatera igitutu, ijwi riva muri nya gicu riti: "Nguwu Umwana wanje nkunda, ni mumwumve."

8Maze baraba hirya no hino, ntibaba bakigira uwundi babona, atari Yesu wenyene, ari kumwe na bo.

9Bariko baramanuka ico gisozi, arabihanikiriza ngo ntihagire umuntu badondera ivyo babonye, Umwana w'umuntu atarazuka avuye mu bapfuye.

10Babika iryo jambo, babazanya ivyo ukuzuka mu bapfuye ivyo ari vyo.

11Baramubaza bati: "Mbega abahinga b'ivyanditswe ko bavuga yuko Eliya akwiye kubanza kuza?"

12Arabishura ati: "Eliya abanza kuza koko, akaroranya vyose neza." Ariko vyanditswe bite ku Mwana w'umuntu yuko azobabazwa vyinshi, agatiturwa?

13Ariko ndababwira yuko Eliya yamaze kuza, kandi bamugiriye uko bagomba kwose, nk'uko vyanditswe kuri we.

14Bariko barashikira abigishwa, babona ishengero ryinshi ribakikije, n'abahinga b'ivyanditswe baharira na bo.

15Uwo mwanya ishengero ryose rimurabutswe riratangara rwose, barirukanga baramusanganira, baramuramutsa.

16Arababaza ati: "Mwariko murabahaririza ibiki?"

17Umwe muri iryo shengero aramwishura ati: "Mwigisha, nari nakuzaniye umwana wanje, yinjiwemwo n'impwemu y'ikiragi.

18Aho imufatiye hose, imutura hasi, akabimba ifuro, akazyegenya amenyo, akagenda arananuka; ndabarira abigishwa bawe ngo bayirukane, irabananira."

19Arabishura ati: "Yemwe abo iki gihe mutizera, nzogeza ryari kubana namwe? Nzogeza ryari kubihanganira? Ni mumunzanire."

20Baramuzana. Iyo mpwemu imubonye ica iramujegeza cane, aratemba, arigaragura, abimba ifuro.

21Yesu abaza se ati: "Amaze igihe kingana iki bimutera bityo?" Aramwishura ko vyahereye mu bwana bwiwe. "

22Kenshi cane imuta mu muriro no mu mazi ngo imwice. Ariko namba hari ico woshobora, tugirire akagongwe udutabare.

23Yesu aramwishura ati: "Uvuze uti: 'Namba wobishobora?" Erega vyose bishobokera uwizeye.

© 2007 Bible Society of Burundi.

24Se w'uwo mwana aca aturika cane ati: "Ndizeye, fasha ukutizera kwanje."

25Yesu abonye abantu bagwirirana biruka, akankamira iyo mpwemu ihumanye ati: "Yewe mpwemu y'ikiragi kandi y'igipfamatwi, ubwanje ndakubariye muvemwo, ntukamugarukemwo namba."

26Iratakamba, iramujegeza cane, imuvamwo, amera nk'uwuhwereye, bituma abenshi bavuga bati: "Arahwereye."

27Yesu amufata ukuboko, aramuvyura, arahagarara.

28Yinjiye mu nzu, abigishwa biwe bamubaza biherereye bati: "Tweho mbega ko vyatunaniye kuyirukana?"

29Arabishura ati: "Bene irya ntikurwamwo n'ikindi atari ugusenga no kwisonzesha."

30Bavayo, baca i Galilaya, agomba ko hatogira uwubimenya.

31Kuko yigisha abigishwa biwe ati: "Umwana w'umuntu azoshirwa mu maboko y'abantu, bazomwica, hashize imisi itatu bamwishe, azozuka."

32Ariko bayoberwa iryo jambo, batinya kurimubaza.

33Bashika i Kaperinawumu. Yinjiye mu nzu arababaza ati: "Mwaharira ibiki mu nzira?"

34Barihorera, kuko mu nzira baharira umukuru wabo uwo ari we.

35Aricara, ahamagara bamwe icumi na babiri, arababwira ati: "Umuntu ni yagomba kuba uwo imbere, ni abe inyuma ya bose, ni abe n'umukozi wa bose."

36Yakira akana, agahagarika hagati yabo; arakarera, arababwira

37ati: "Uwuzokwakira umwe mu twana nk' aka mw'izina ryanje, azoba anyakiriye; kandi uwunyakira, si jewe yakira, ariko yakira uwantumye."

38Yohana aramubwira ati: "Mwigisha, twabonye umuntu yirukana abadayimoni mw'izina ryawe, turamubuza, kuko atadukurikira."

39Yesu aramwishura ati: "Ntimumubuze, kuko ata muntu azokora igitangaza mw'izina ryanje, azoshobora guca amvuga nabi."

40Kuko uwutari umwansi wacu ari mu ruhande rwacu.

41Umuntu wese azobaha n'urwato rw'amazi kuko muri mw'izina rya Kristo, ndababwire ukuri, ntazobura impera yiwe.

42Kandi uwuzotsitaza n'umwe muri abo bato banyizera, iciza ni uko yohambirirwa urusyo ruremereye kw'izosi, agatererwa mu kiyaga."

43Ukuboko kwawe ni kwagutsitaza, uguce igikonjo; vyokubera vyiza kwinjira mu bugingo ucitse igikonjo, hako uja muri Gehinomu mu muriro utazima, ufise amaboko yompi;

© 2007 Bible Society of Burundi.

[ 44aho inyo zabo zidapfa, kandi n'umuriro utazima. ]

45N'ikirenge cawe ni cagutsitaza, ugice; vyokubera vyiza kwinjira mu bugingo ucitse ikirenge, hako utererwa muri Gehinomu, ufise ibirenge vyose;

[ 46aho inyo zabo zidapfa, kandi n'umuriro utazima. ]

47N'ijisho ryawe ni ryagutsitaza, urinogore; vyokubera vyiza kwinjira mu bwami bw'Imana upfuye ijisho, hako utererwa muri Gehinomu ufise amaso yompi;

48aho inyo zabo zidapfa, kandi n'umuriro utazima.

49Kandi umuntu wese azoryoshwa n'umuriro, nk'uko umunyu uryosha.

50Umunyu ni mwiza, ariko umunyu woshira uburyohe, mwoba mukiwuryohesha iki? Mugire umunyu mu mitima yanyu, kandi mubane amahoro.

## Mariko 10

1Arikora avayo, aja mu gihugu c'i Yudaya no hakurya ya Yorodani, ishengero ryongera gukoranira kuri we, yongera kubigisha nk'uko yamenyereye.

2Abafarisayo baza kuri we, baramugeza bati: "Mbega biremerwa ko umuntu yirukana umugore wiwe?”

3Na we arababaza ati: "Mose yabagereye iki ?”

4Baramwishura bati: "Mose yemeye ko handikwa ikete ryo kuvavanura, akamwirukana.”

5Yesu arababwira ati: "Gukomantara kw'imitima yanyu ni kwo kwamwandikishije ico cagezwe.”

6Ariko uhereye kw'itanguriro ry'ukuremwa, Imana yabaremye bari uburyo bubiri.

7Ni co gituma umuntu azosiga se na nyina, akabana n'umugore wiwe ubutakivana,

8bompi bakaba umubiri umwe. Bituma batakiri babiri, ariko baba babaye umubiri umwe.

9Nuko ico Imana yamatanije umuntu ntazokimature.

10Yinjiye mu nzu abigishwa bongera kumubaza iryo jambo.

11Arababwira ati: "Umuntu wese yirukana umugore wiwe, akarongora uwundi, aba asambanye kandi amuhemukiye.”

12Kandi na we ubwiwe, ni yahukana n'umugabo wiwe, akarongorwa n'uwundi, azoba asambanye.”

13Maze bamuzanira abana bato, ngo abakoreko; abigishwa barabakankamira.

14Maze Yesu abibonye, araraka, arababarira ati: "Ni mureke abana bato baze aho ndi, ntimubabuze, kuko ubwami bw'Imana ari ubwo abameze batyo.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

15 Ndababwire ukuri, uwutazokwakira ubwami bw'Imana nk'umwana muto, ntazobwinjiramwo na gatoya. “

16 Arabarera, arabahezagira, abarambitseko ibiganza.

17 Agisohoka ngo akomeze urugendo, haza umuntu kuri we yirukanga, aramupfukamira, aramubaza ati:" "Mwigisha mwiza, nkore iki, ngo nze ndagwe ubugingo budashira?”

18 Yesu aramubaza ati: "Unyitira iki mwiza? Nta mwiza, atari umwe, ni we Mana.”

19 Ko uzi ivyagezwe, ngo Ntukice, ntugasambane, ntukibe, ntukagirize abandi ibinyoma, ntukagunge, wubahe so na nyoko.

20 Aramubwira ati: "Mwigisha, ivyo vyose naravyitondeye, mpereye mu buto bwanje.”

21 Yesu amwitegereje aramukunda, aramubwira ati: "Uhajije kimwe: genda, ushore ivyo utunze vyose, ugabire aboro, ni ho uzogira itunga mw'ijuru, uteko uze, unkurikire.”

22 Yumvise iryo jambo arijirwa, agenda ababaye, kuko yarafise itunga ryinshi.

23 Yesu yeraguza amaso, abwira abigishwa biwe ati: "Erega biragoye ko aba vyinshi binjira mu bwami bw'Imana !”

24 Abigishwa batangazwa n'amajambo yiwe. Yesu yongera kubabwira ati: "Bana banje, erega biragoye ko abizigiye ubutunzi binjira mu bwami bw' Imana!

25 Icoroshe ni uko ingamiya yoca mu zuru ry'urushinge biruta umutunzi ko yinjira mu bwami bw' Imana.”

26 Baratangara rwose bati: "None rero, ni nde ashobora gukizwa?”

27 Yesu arabitegereza, arababwira ati: "Kubwo abantu ntigishoboka, ariko ku Mana si uko, kuko vyose bishobokera Imana.”

28 Maze Petero atangura kumubwira ati: "Raba, twebwe twaretse vyose turagukurikira.”

29 Yesu arababwira ati: "Ndababwire ukuri, Nta waretse inzu, canke abavukanyi biwe, canke bashiki biwe, canke nyina, canke se, canke abana, canke itongo, kubwanje no ku bwo ubutumwa bwiza,

30 atazobishumbushwa ijana muri iki gihe ca none, inzu, n'abavukanyi biwe, na bashiki biwe, na ba nyina, n'abana, n'itongo, bisukiranijwe no guhamwa, kandi mu gihe kizoza azohabwa ubugingo budashira.”

31 Ariko benshi b'imbere bazoba abo inyuma, kandi abo inyuma bazoba abo imbere.

32 Bari mu nzira baduga i Yerusalemu. Yesu yari abagiye imbere, baratangara, abamukurikira baratinya. Yongera kujana bamwe icumi na babiri bari ukwabo, atangura kubabarira ibigira bimubeko

© 2007 Bible Society of Burundi.

33ati: "Ehe, turaduze i Yerusalemu, kandi Umwana w'umuntu azoshirwa mu maboko y'abaherezi bakuru n'abahinga b'ivyanditswe, bazomucira urubanza rwo gupfa, bamuhe abanyamahanga,

34bamushinyagurire, bamuvume amate, bamukubite cane, bamwice, maze imisi itatu ishize azozuka."

35Yakobo na Yohana abana ba Zebedayo baramwegera baramubwira bati: "Mwigisha, turagomba ko uduha ico tugusaba cose."

36Arababaza ati: "Mugomba ko ndabaha iki?"

37Baramwishura bati: "Uduhe ngo tuzokwicare, umwe i buryo bwawe uwundi i bubamfu, mu bwiza bwawe."

38Maze Yesu arabishura ati: "Ntimuzi ico musaba. Mwoshobora kunywera ku gikombe nywerako, canke kubatizwa umubatizo mbatizwa jewe?"

39Baramwishura bati: "Turashobora." Yesu arababwira ati: "Igikombe nywerako, muzokinywerako, kandi muzobatizwa umubatizo mbatizwa jewe."

40Ariko gutanga ivyicaro i buryo bwanje canke mu bubamfu, si ivyanje, kiretse abo vyateguriwe.

41Bamwe icumi bavyumvise batangura kwitonganiriza ivya Yakobo na Yohana.

42Yesu arabahamagara, arababwira ati: "Murazi yuko abavugwa ko baganza amahanga bayatwaza amanyama, kandi n'abakuru bayo bayagirako ububasha.

43Ariko muri mwebwe si ko biri. Yamara uwugomba kuba mukuru muri mwebwe, azobe umukozi wanyu.

44Kandi uwugomba kuba uwo imbere, azobe umushumba wa mwese.

45Kuko na none Umwana w'umuntu atazanywe no gukorerwa, atari ugukorera abandi, no gutanga ubugingo bwiwe ko incungu ya benshi."

46Nuko bashika i Yeriko. Akivana i Yeriko n'abigishwa biwe n'ishengero ryinshi, umwana wa Timayo yitwa Barutimayo, impumyi yasegerereza, yari yicaye i ruhande y'inzira.

47Yumvise ko ari Yesu Umunyanazareti atangura gutakamba ati: "Yesu, mwana wa Dawidi, ngirira imbabazi."

48Abantu benshi baramuzibiranya ngo ahore, ariko arushiriza cane gutakamba ati: "Mwana wa Dawidi, ngirira imbabazi."

49Yesu arahagarara, arababarira ati: "Ni mumuhamagare." Bahamagara iyo mpumyi, barayibwira bati: "Humura, va hasi, araguhamagaye."

50Na yo ita impuzu zayo, ihaguruka vuba, yegera Yesu.

© 2007 Bible Society of Burundi.

51Yesu arayibaza ati: "Ugomba ko ndagukorera iki?" Ino mpumyi iramwishura iti: "Ndagomba guhumuka, Mwigisha."

52Yesu arayibwira ati: "Genda, ukwizera kwawe kuragukijije." Aca arahumuka, amukurikira ku nzira.

## Mariko 11

1Bageze hafi y'i Yerusalemu, bashikira i Betifage n'i Betaniya ku musozi wa Elayono, atuma babiri bo mu bigishwa biwe,

2arababarira ati: "Muje muri iriya mihana iri imbere yanyu; ni mwayishikamwo, muca mubona inyana y'indogoba iziritse, ata muntu yigeze kuyigenderako; muyiziture muyizane."

3Kandi ni hagira uwubabaza ati: "Ivyo mubikoreye iki?" Mumwishure muti: "Databuja ni we ayigomba." Uwo mwanya arayirungika ino.

4Baragenda, basanga inyana y'indogoba iziritse i ruhande y'irembo ku nzira, barayizitura.

5Bamwe mu bahahagaze barababaza bati: "Mukora iki ko muzitura iyo nyana?"

6Na bo babishura nk'uko Yesu yababariye; barabareka.

7Bazana iyo nyana aho Yesu ari, bayishirako impuzu zabo, ayicarako.

8Benshi basasa impuzu zabo mu nzira, abandi basasa amashami y'ibiti, ayo baciye mu matongo.

9Abari imbere yiwe n'abamukurikiye barasemerera bati: "Hoziyana, hashemezwe uwuje mw'izina ry' Uhoraho,

10ubwami buje bushimwe, ni bwo bwa sogokuruza Dawidi; Hoziyana mw'ijuru." "

11Ashika i Yerusalemu, yinjira mu rusengero, maze ahejeje kweraguza vyose, kuko bwari bugorovye, arasohoka, aja i Betaniya, ajanye na bamwe icumi na babiri.

12Bukeye bamaze kuva i Betaniya, yumva arashonje.

13Akiri kure, abona umusukoni uriko amababi, arawegera ngo kumbure yogira ico awusangako; awushitseko ntiyagira ico awubonako, atari amababi; kuko kitari igihe co kwama c'umusukoni.

14Arawubwira ati:" "Ntugapfe hari uwuriye ku nsukoni zawe uhereye ubu ugashitsa ibihe bidashira." " Abigishwa biwe baravyumva.

15Bashika i Yerusalemu. Yinjira mu rusengero, atangura guhindira hanze abarudandarizamwo n'abaruguriramwo, ahenura imeza y'abavunja amahera n'intebe z'abariko baragurwako inuma,

16ntiyakundira umuntu n'umwe guhita mu rusengero atwaye ikintu co mu bikoresho.

© 2007 Bible Society of Burundi.

[17]Arigisha arababwira ati:" "Mbega ntivyanditswe, ngo ingoro yanje izokwitwa inzu yo gusengerwamwo n'amahanga yose ?" Ariko mwebwe mwayihinduye nk'isenga ry'abambuzi. “

[18]Abaherezi bakuru n'abahinga b'ivyanditswe bavyumvise barondera ingene bomwica, kuko bamutinya, kuko abantu bose batangazwa n'inyigisho ziwe.

[19]Iyo bugorovye, yama ava mu gisagara.

[20]Bukeye mu gitondo ca kare bariko barahita babona wa musukoni, wahereye ku mizi wakabiranye.

[21]Petero yibutse aramubwira ati:" "Mwigisha, ehe wa musukoni wavumye wakabiranye.”

[22]Yesu aramwishura, arababwira ati: "Mwamane ukwizera Imana.”

[23]Ndababwira ukuri yuko umuntu wese yobwira uwu musozi ati: "Shinguka utabwe mu kiyaga, ntabikekeranye mu mutima, ariko akizera yuko ico avuze gikorwa, azokibona.

[24]Ni co gitumye ndababwira yuko ivyo musenga canke musaba vyose, mwizere yuko mubihawe, kandi muzobibona.

[25]Kandi ni mwahagarara musenga, ni haba hari ico mupfa n'uwundi, mukimuharire, ngo So wo mw'ijuru na we abaharire ivyaha vyanyu,

[ [26]ariko ni mutaharira abandi, na So wo mw'ijuru ntazobaharira ivyaha vyanyu. ]”

[27]Bongera kuja i Yerusalemu. Akigendagenda mu rusengero, abaherezi bakuru, abahinga b'ivyanditswe n'abashingantahe baza kuri we,

[28]baramubaza bati: "Ni ububasha ki bugutera gukora ivyo? Canke ni nde yaguhaye ubwo bubasha bwo kubikora?”

[29]Yesu arabishura ati: "Nanje hinge ndababaze ijambo rimwe, munyishure; mpeze ndababarire ububasha bunkoresha ivyo.

[30]None ukubatiza kwa Yohana kwaturutse mw'ijuru, canke se mu bantu? Ni munyishure.”

[31]Baravugana bati: "Ni twavuga ko ari mw'ijuru; ahava atubaza ati: 'Ni igiki cababujije kumwemera?'“

[32]Ariko mbega tuvuge tuti: "Ni mu bantu?" Batinya abantu, kuko bose biyumvira badakekeranya yuko Yohana yavugishwa n'Imana.

[33]Bishura Yesu bati: "Ntituhazi." Yesu arababwira ati: "Nuko rero nanje sindababwira ububasha bunkoresha ivyo."

## Mariko 12

© 2007 Bible Society of Burundi.

1 Hanyuma Yesu atangura kubabwira mu migani ati: "Habaye umuntu yateye umurima w'inzabibu, awuzitirira uruzitiro, yimbamwo ubwato bw'ikinogo, yubakamwo umutara, arusigarana abarimyi, aja mu mahanga.”

2 Hageze mw'iyera atuma umukozi ku barimyi, ngo aze yake abo barimyi ivyamuwe mu ruzabibu.

3 Baramufata, baramushishagura, bamurungika iminwe iri gusa.

4 Yongera kubatumako uwundi mukozi, uwo bamuca uruguma mu mutwe, baramutetereza.

5 Atuma uwundi, uwo we baramwica; atuma n'abandi benshi, bamwe barabashishagura, abandi barabica.

6 Yari agisigaranye umwe, umwana wiwe akunda; hanyuma amubatumako ati: "Bazosonera umwana wanje.”

7 Maze abo barimyi baravugana bati: "Urya ni we samuragwa; ni muze tumwice, umwandu uzobe uwacu.”

8 Baramufata, baramwica, bamukwegera inyuma y'umurima w'inzabibu.

9 None nyene uwo murima azogenza ate? Abo barimyi azoza abice rubi, umurima w'inzabibu awusigarane abandi.

10 Mbega nta ho murasoma iki canditswe, ngo ibuye abubatsi bagaye Ni ryo ryahindutse irigumya imfuruka;

11 Ivyo vyavuye k'Uhoraho, Kandi ni igitangaza mu maso yacu? “

12 Barondera ingene bomufata, batinya abantu, kuko bamenye yuko ari bo yaciyeko uwo mugani; bamusiga hano, baragenda.

13 Bamwe mu Bafarisayo n'abantu ba Herode bamutumako, ngo bamutegeshe amajambo.

14 Baje baramubwira bati:" "Mwigisha, turazi yuko uri umunyakuri, kandi ko udatinya umuntu wese ku kigohe, kuko udatinya ijunja ry'abantu, ariko ko wigisha inzira y'Imana vy'ukuri. Mbega biremerwa gutanga ikori rya Kayisari, canke ntivyemerwa?

15 Turitange, canke dusigeho?" Maze amenye uburyarya bwabo arababaza ati: "Mungereza iki? Ni munzanire idenariyo, ndayirabe.”

16 Barayizana. Arababaza ati: "Iki gishushanyo n'ibi vyanditsweko ni ivya nde?" baramwishura bati: "Ni ivya Kayisari.”

17 Yesu arababarira ati: "Ivya Kayisari ni mubihe Kayisari, ivyo Imana mubihe Imana." " Baramutangarira cane.

18 Maze Abasadukayo baza kuri we, abahakana yuko ata kuzuka kuriho, baramubaza

© 2007 Bible Society of Burundi.

19bati:" "Mwigisha, Mose yatwandikiye yuko mwene nyina w'umuntu ni yapfa, agasiga umugore wiwe, adasize umwana, mwene nyina akwiye gucura uwo mugore, ngo ahonore mwene nyina.

20Habaye abavukana indwi: uwa mbere ararongora, arapfa, ntiyasiga abana;

21uwa kabiri acura umupfakazi wiwe, na we apfa adasize abana n'uwa gatatu aba atyo;

22bose uko ari indwi ntibasiga abana. Hanyuma ya bose, na wa mugore arapfa.

23Mbega mw'izuka azoba muka nde muri bo? Ko bari bamufise bose uko ari indwi!"

24Yesu arabishura ati: "Igituma muzimira mbega si uko mutamenye ivyanditswe canke ubushobozi bw'Imana?

25Aho bazozukira mu bapfuye ntibazorongora kandi ntibazoshingirwa; bazoba nk'abamarayika bo mw'ijuru."

26Ariko ivyo abapfuye yuko bazurwa, nta ho murasoma mu gitabo ca Mose hamwe havuga ivyo Igisaka c'amahwa, ingene Imana yamubwiye iti: "Ni jewe Mana ya Aburahamu, Imana ya Isaka, Imana ya Yakobo?"

27Imana si iyo abapfuye, ni iyo abariho; mwarazimiye cane.

28Haza umwe mu bahinga b'ivyanditswe yumva babazanya, amenye ko abishuye neza, aramubaza ati: "Ibwirizwa ry'imbere muri yose ni irihe?"

29Yesu aramwishura ati: "Iryo imbere ni iri, ngo ni mwumve, yemwe Bisirayeli, Uhoraho Imana yacu ni we Uhoraho wenyene."

30Kandi mukundishe Uhoraho Imana yanyu imitima yanyu yose, n'ubugingo bwanyu bwose, n'ubwenge bwanyu bwose, n'inkomezi zanyu zose.

31Irya kabiri ngiri, Mukunde abavukanyi banyu nk'uko mwikunda; nta rindi bwirizwa risumba ayo.

32Uno muhinga w'ivyanditswe aramubwira ati: "Ni koko, Mwigisha, uvuze ivyo ukuri yuko ari Imwe, nta yindi, atari yo yonyene;

33kandi kuyikundisha umutima wose, n'ugutahura kwose, n'inkomezi zose, bo n'ugukunda mugenzawe nk'uko wikunda, biruta cane ibimazi vyose bituriwe n'ibidaturiye."

34Yesu abonye amwishuranye ubwenge, aramubwira ati: "Nturi kure y'ubwami bw'Imana." Ntihagira uwusubira kwubahuka kugira ico amubaza.

35Kandi Yesu yigishiriza mu rusengero, arababaza ati: "Abahinga b'ivyanditswe bavuga bate yuko Kristo ari umwana wa Dawidi?"

36Dawidi ubwiwe yavugishijwe na Mpwemu Yera, avuga ati: "Uhoraho yabariye Umwami wanje Ati: "Icara i buryo bwanje, Ushitse aho nzoshirira abansi bawe musi y'ibirenge vyawe."

© 2007 Bible Society of Burundi.

37Dawidi ko ari we amwita Umwami, none ivyo kuba umwana wiwe vyavuye hehe?" Abenshi mw'ishengero banezezererwa kumwumva.

38Kandi ababarira mu kwigisha kwiwe ati: "Mwirinde abahinga b'ivyanditswe, bakunda kugenda bambaye imvune, no kugirwako bwakeye mu makoraniro,

39no kwicara ku ntebe z'icubahiro mu masengero y'Abayuda, n'ivyicaro vyo haruguru aho batumiwe.

40Barya ingo z'abapfakazi, kandi basengesha menshi bahumba; abo bazocirwa urubanza ruruta izindi."

41Yicara yerekeye ku masandugu y'amahera, abona ingene ishengero rishikana amahera, bayaterera muri ayo masandugu; benshi b'abatunzi batereramwo menshi.

42Haza umupfakazi w'umworo, atereramwo amasenge abiri, ni yo kuta.

43Ahamagara abigishwa biwe, arababwira ati: "Ndababwire ukuri, uwu mupfakazi w'umworo ashikanye ibirengeye ivyo bose batereye mu masandugu;

44kuko bose bashikanye ku musesekara, ariko we ku bworo

## Mariko 13

1Ariko arasohoka mu rusengero, umwe mu bigishwa biwe aramubwira ati: "Mwigisha, raba aya mabuye uko ari, n'iyi nyubako uko iri !"

2Yesu aramubaza ati: "Uraraba iyi nyubako ihambaye?" Ntihazosigazwa ibuye rigeretse ku rindi, ridasamburiwe hasi.

3Yicaye ku musozi wa Elayono yerekeye ku rusengero, Petero, Yakobo, Yohana na Andereya baramubaza bihereranye

4bati: "Tubwire, ivyo bizobaho ryari, ikimenyetso kizoba iki, c'igihe ivyo vyose bizoba bigira bishike?"

5Yesu atangura kubabwira ati: "Mwirinde ntihagire uwubazimiza."

6Benshi bazoza mw'izina ryanje bati: "Ndi we; kandi bazozimiza benshi."

7Kandi ni mwumva intambara n'impuha z'intambara, ntimuzohagarike imitima; ntibizobura kubaho, ariko umuhero uzoba utaraza.

8Kuko ihanga rizotera irindi hanga, n'ubwami buzotera ubundi bwami, isi izonyiganyiga henshi, amapfa azotera. Ivyo n'itanguriro ryo kuramukwa.

9Ariko mwirinde, kuko bazobashengerana mu manza, muzokubitirwa mu masengero y'Abayuda, kandi muzohagarara imbere y'abaganza n'abami babampora, mube ikimenyetso kibabere icabona.

10Ubutumwa bwiza bukwiye kubanza kuvugwa mu mahanga yose.

© 2007 Bible Society of Burundi.

11Kandi ni babajana babashengeranye, ntimuzohagarikire imitima ico muzovuga; ico muzohabwa cose muri ako kanya, muzobe ari co muvuga, kuko atazoba ari mwebwe muvuga, azoba ari Mpwemu Yera.

12Umuntu azoshengerana uwo bavukana ngo bamwice, na se w'umwana azomushengerana, n'abana bazogabagabira abavyeyi babicishe.

13Muzoba mwanswe na bose, babahora izina ryanje, ariko uwihangana, agashitsa iherezo, ni we azokira.

14Ariko, aho muzobonera ca kizira c'ishano ry'ubugesera gihagaze aho kidakwiye, (uwusoma ni yiyubare), ico gihe abazoba bari i Yudaya bazohungire ku misozi miremire,

15uwuzoba ari hejuru ku nzu ntazokwururutswe no kwinjira gusahura ikintu cose mu nzu yiwe;

16uwuzoba ari mu mirima ntazosubizwe inyuma no gusahura umutamana wiwe.

17Ariko muri iyo misi abazoba batwaye inda n'abonsa bazobona ibara;

18kandi muzosenge kugira ngo ntibizobe mu gatasi.

19Kuko iyo misi izoba iyo amarushwa atigeze kubaho, kuva kw'itanguriro ry'ibiremwa Imana yaremye ugashitsa n'ubu, kandi atazokwongera kubaho.

20Iyaba Umwami Imana itogeruye iyo misi, ntihorokotse umuntu n'umwe, ariko ku bwo abatoranijwe yatoranije, yarayigeruye.

21Ico gihe ni hagira umuntu ababwira ati: "Ehe Kristo ari hano;" canke ati: "Ari hariya: ntimuzovyemere.”

22Kuko hazokwaduka abigira Kristo n'abigira abavugishwa n'Imana, bagakora ibimenyetso n'ibitangaza, kugira ngo bazimize n'abatoranijwe, ni vyashoboka.

23Ariko mweho mwirinde; raba ndabibabwiye vyose bitaraba.

24Ariko muri iyo misi, hanyuma y'ayo marushwa, izuba rizocura umwiza, n'ukwezi ntikuzoba kucaka umuco wakwo,

25n'inyenyeri zizoba ziriko zirakoragurika ziva kw'ijuru, n'ivyo inkomezi vyo mu majuru bizonyiganyizwa.

26Ni ho bazobona Umwana w'umuntu aje mu bicu, ari n'ububasha bwinshi n'ubwiza.

27Ni ho azotuma abamarayika, akoranye abatoranijwe biwe, bave mu birere bine, guhera ku mpera y'isi kugeza impera y'ijuru.

28Ni mwigire ku musukoni umugani wawo, ishami ryawo iyo ritoshe, amababi agatutuza, mumenya yuko agatasi kari hafi.

29Nuko namwe ni mwabona ivyo bibaye, muzomenye ko ari hafi, ku rugi.

30Ndababwire ukuri; abo iki gihe ntibazorangira, ivyo vyose bitarashika.

© 2007 Bible Society of Burundi.

31 Ijuru n'isi bizorangira, ariko amajambo yanje nta co azoba.

32 Ariko uwo musi canke iyo saha, nta wubizi, n'iyo boba abamarayika bo mw'ijuru, canke Umwana w'Imana, atari Data gusa.

33 Mwiyubare, mube maso, musenge; kuko mutazi igihe bizoshikira.

34 Ni nk'umuntu yasize urugo rwiwe, aja mu kindi gihugu, asigarana abashumba biwe urugo, kandi ahejeje kugerera umuntu wese igikorwa ciwe, abarira umuteramyi ngo yame agavye.

35 Nuko mwame mugavye, kuko mutazi igihe nyene urugo azozamwo, namba ari ku mugoroba, canke mu gicugu, canke mu nkoko, canke umutwenzi ukitse;

36 kugira ngo ni yaza giturumbuka, ntasange musinziriye.

37 Ariko ico ndababariye, ndakibarira bose nti: "Mwame mugavye."

## Mariko 14

1 Hari hasigaye imisi ibiri, imisi mikuru ya Pasika ikagera, ni yo yo kurya imitsima itambiwe. Abaherezi bakuru n'abahinga b'ivyanditswe barondera uburyo bwo guhenda Yesu ngo bamufate bamwice;

2 kuko bavuga ko batamufata mu misi mikuru, abantu bogumuka.

3 Ari i Betaniya mu nzu kwa Simoni umunyamibembe, yicaye ariko ararya, haza umugore afise agacupa k'amavuta amota cane, y'igiciro kinini cane, y'agati kitwa narada; amena ako gacupa k'amavuta ayamusuka ku mutwe.

4 Bamwe muri bo baritonganya bati: "Mbega ubu buhombe bw'aya mavuta ni ubwo iki?”

5 Kuko yoshoboye kugurwa idenariyo amajana atatu arenga, zigahabwa aboro; baramwidodombera.

6 Yesu arababarira ati: "Ni mumureke! Mumubabariza iki? Ankoreye igikorwa ciza.

7 Aboro muramana imisi yose; aho mwogombera mwobagirira neza; ariko jeho ntituja kwamana imisi yose.

8 Akoze uko ashoboye, ansutse amavuta ku mubiri awutegurira guhambwa bitaraba.

9 Ndababwire ukuri, aho ubutumwa bwiza buzovugwa hose mw'isi yose, n'ico uwu akoze kizovugwa, kibe icibutso ciwe." “

10 Kandi Yuda Isikaryota, yari umwe muri bamwe icumi na babiri, aja ku baherezi bakuru, ngo azomubaronkere.

11 Bavyumvise baranezerwa, basezerana kumuha amahera y'ifeza. Arondera uburyo bwo kumubaronkera.

© 2007 Bible Society of Burundi.

12Ku musi wo gutangurirako ivyo kurya imitsima itambiwe, uwo babagako umwagazi w'intama wa Pasika, abigishwa biwe baramubaza bati:" "Ugomba ko twoja hehe gutegura ivya Pasika ngo ubirye?”

13Atuma babiri mu bigishwa biwe, arababarira ati: "Ni muje mu gisagara, umugabo muribuhure yikoreye umubindi w'amazi mumukurikire.

14Aho aja kwinjira mubwire nyene urwo rugo muti:'Umwigisha agize ngo indaro yiwe y' aho asangirira ivya Pasika n'abigishwa biwe iri hehe?”

15Ubwiwe aribubereke inzu nini yo hejuru, isezeye, iteguritse; mube ari yo muduteguriramwo." “

16Ba bigishwa baragenda, baja mu gisagara, babisanga uko yabibabariye; bategura ivya Pasika.

17Bugorovye Yesu azanana na bamwe icumi na babiri.

18Bicaye bariko bararya, Yesu arababwira ati:" "Ndababwire ukuri; umwe muri mwebwe, dusangira, agira angure.”

19Batangura kubabara, bamubaza umwumwe bati: "Mbega ni jewe?”

20Arabishura ati: "Umwe muri mwebwe icumi na babiri, turiko turakoreza amaboko rimwe mu mubehe, ni we.”

21Umwana w'umuntu agira agende nk'uko vyanditswe kuri we; ariko uwo muntu agura Umwana w'umuntu azobona ibara; uwo muntu ivyomubereye vyiza iyaba atavutse.

22Maze bariko bararya, yakira umutsima; awuhezagiye arawumanyagura, arawubaha ati: "Ni mwakire, uwu ni umubiri wanje.”

23Yakira igikombe; agishimiye Imana arakibaha, bakinywerako bose.

24Arababarira ati: "Ico ni amaraso yanje y'isezerano, aviriye benshi.”

25Ndababwire ukuri, sinzokwongera kunywa ku nzabibu, gushitsa kuri wa musi nzonywera umutobe wazo musha mu bwami bw'Imana.

26Bahejeje kuririmba, barasohoka, baja ku musozi wa Elayono.

27Maze Yesu arababwira ati: "Mwese muhava mutsitazwa; kuko handitswe, ngo nzokubita umwungere, intama zisanzare.”

28Ariko ni namara kuzurwa, nzobitangira imbere kuja i Galilaya.

29Maze Petero aramubwira ati: "N'iyo vyotsitaza bose, urakura jeho.”

30Yesu aramubwira ati: "Ndakubwira ukuri yuko wewe ubwawe uwu musi muri iri joro nyene, inkoko itarabika uhava unyihakana gatatu.”

31Ariko arihanukira cane ati: "Ni iyo noba nkwiye gupfana nawe, sinokwihakana." N'abandi na bo bavuga batyo bose.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

32 Maze bashika ahantu hitwa i Getsemane, abarira abigishwa biwe ati: "Ba muricaye hano, mbanze nje gusenga.”

33 Ajana Petero, Yakobo na Yohana, atangura kugira ubwoba no guhagarika umutima cane.

34 Arababwira ati: "Umutima wanje uri n'akabonge kagomba kunyica; ba muragumye hano, mube maso.”

35 Yunguruza imbere gatoya, yubama hasi arasenga ngo ico gihe kimurengane, asangwa bishoboka

36 Ati: "Abba, Data, vyose biragushobokera; kura iki gikombe kindengane, ariko ntibibe uko jewe ngomba, yamara bibe uko wewe ugomba.”

37 Aragaruka, asanga basinziriye, abaza Petero ati: "Simoni, urasinziriye? Nturushe uba maso n'isaha n'imwe?

38 Ni mube maso, musenge, ntimuje mu mosha mabi. Umutima ni wo ukunze, ariko umubiri ufise intege nke.”

39 Yongera kugenda, arasenga, avuga amajambo amwe n'aya mbere.

40 Yongera kugaruka, asanga basinziriye, kuko amaso yabo yari aremerewe cane, ntibamenya ico bamwishura.

41 Agaruka ubugira gatatu, arababarira ati: "Ni mwisinzirire noneho, muruhuke; biraheze. Igihe kirashitse; raba Umwana w'umuntu ashizwe mu maboko y'abanyavyaha.

42 Ni muvyuke, tugende, ehe uwunguze ari hafi.”

43 Buno nyene akivuga, Yuda, umwe muri bamwe icumi na babiri, araza, azananye n'igitero kizanye inkota n'amahiri, kivuye ku baherezi bakuru n'abahinga b'ivyanditswe n'abashingantahe.

44 Ariko uwumugura yari yabahaye ikimenyetso ati: "Uwo nja gusoma azoba ari we, mumufate, mumujane mumugumije.”

45 Ashitse, aca aramwegera ati: "Mwigisha;" maze aramusomagura.

46 Bamushorerako amaboko, baramufata.

47 Maze umwe mu bahagazeho asokora inkota, ayikubita umushumba w'umuherezi mukuru, amuca ugutwi.

48 Yesu arababaza ati: "Mbega munziye kumfata nk'umwambuzi, muzanye inkota n'amahiri?

49 Ko namana namwe mu rusengero nigisha imisi yose, ntimumfate; ariko ibi bibaye kugira ngo ivyanditswe bishike." “

50 Maze bose baramuta barahunga.

© 2007 Bible Society of Burundi.

51Kandi umuhungu umwe w'umusore amuja inyuma, yizingiyeko impuzu imwe gusa, baramufata;

52abatana impuzu yiwe, ahunga ataco yambaye.

53Bajana Yesu ku muherezi mukuru, abaherezi bakuru bose n'abashingantahe n'abahinga b'ivyanditswe bakoraniraho.”

54Petero amuja inyuma barenga arenguka, ashika imbere mu rugo rw'umuherezi mukuru; yicarana n'abagendanyi yota umuriro.

55Maze abaherezi bakuru n'abashingantahe ba sentare bose baronderera Yesu ibirego vyomwicisha, barabibura.

56Naho abamurega ibinyoma bari benshi, ibirego vyabo ntivyari bihuye.

57Bamwe bava hasi, baramubeshera

58bati: "Twebwe twaramwumvise avuga ngo yosambura uru rusengero rwubatswe n'intoke akubaka urundi rutubatswe n'intoke mu misi itatu.”

59Ariko na ho nyene amajambo yabo ntiyari ahuye.

60Umuherezi mukuru arahaguruka, ahagarara hagati, abaza Yesu ati: "Nta co wiregura? Aba bakwagirije iki?”

61Arihorera, ntiyamwishura na rimwe. Umuherezi mukuru yongera kumubaza ati: "Ni wewe Kristo, Umwana w'Iyishimwa?”

62Yesu aramwishura ati: "Ndi we; kandi muzobona Umwana w'umuntu yicaye i buryo bw'ububasha bw'Imana, azananye n'ibicu vyo kw'ijuru.”

63Maze umuherezi mukuru yitabagurirako imyambaro yiwe, aravuga ati: "Turacaronderera iki ivyabona?

64Muriyumviye ingene atutse Imana; mugira ngo iki?" Bose bamucira urubanza ngo akwiye gupfa.

65Bamwe batangura kumuvuma amate, bamupfuka mu maso, bamukubita ibipfunsi bati: "Ni udupfindure." " Abagendanyi bamushikizako amashi.

66Petero akiri mu rugo ahahera hepfo, haza umwe mu ncoreke z'umuherezi mukuru,

67abonye Petero yota umuriro, aramwitegereza, aramubwira ati:" "Nawe nyene mwari kumwe na wa Munyanazareti Yesu.”

68Na we arabihakana ati: "Sinzi ico uvuze, sindagitahuye." Maze arunguruza, ashika mu bikingi vy'irembo; inkoko irabika.

69Ya ncoreke imubonye, itangura kwongera kubwira abahagazeho iti: "Uwu ni uwo muri bo.”

70Na we yongera kubihakana. Maze hahise akanya, abahagazeho bongera kubwira Petero bati: "Ni ivyo ukuri uri uwo muri bo, bitayeko uri Umunyagalilaya.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

71 Na we atangura kurahira arisiba ati: "Uwo muntu muvuga sindanamuzi.”

72 Uwo mwanya inkoko ibika ubugira kabiri. Petero yibuka rya jambo Yesu yamubwiye ati: "Inkoko itarabika, uja kunyihakana gatatu;" avyiyumviriye, ararira.

## Mariko 15

1 Umutwenzi utambitse, uwo mwanya abaherezi bakuru, abashingantahe, abahinga b'ivyanditswe n'abashingantahe ba sentare bose baja inama, baboha Yesu, baramujana, bamushikiriza Pilato.

2 Pilato aramubaza ati: "Ni wewe Mwami w'Abayuda?" Na we aramwishura ati: "Urarivuze.”

3 Abaherezi bakuru bamurega vyinshi.

4 Pilato yongera kumubaza ati: "Nta co wiregura?" Umve ivyo bakwagiriza ingene ari vyinshi. “

5 Maze Yesu ntiyasubira kwishura ijambo na rimwe, bituma Pilato atangara.

6 Muri iyo misi mikuru yahora abarekurira imbohe imwe, uwo bamusavye.

7 Hariho umwe yitwa Baraba, yabohanywe n'abagararije, bishe abantu muri ukwo kugarariza.

8 Ishengero riraduga, ritangura gusaba ko abagirira nk'uko yamenyereye.

9 Pilato arababaza ko bagomba ko abarekurira Umwami w'Abayuda?

10 Kuko yamenye yuko ishari ari ryo ryatumye abaherezi bakuru bamutanga.

11 Maze abaherezi bakuru bosha ishengero gusaba ngo ivyoba vyiza abarekurire Baraba.

12 Pilato yongera kubabaza ati:" "None uwo mwita Umwami w'Abayuda, we ndamugire nte?”

13 Bongera kuyogora bati: "Mubambe.”

14 Pilato arababaza ati: "Ku ki? Yakoze ikibi ki?" Maze barushiriza kuyogora cane bati: "Mubambe.”

15 Pilato agomvye kumara ishavu ishengero, abarekurira Baraba, maze atanga Yesu ngo abambwe, amaze kumutonagura.

16 Maze abasoda bamujana imbere mu rugo, ari rwo boma, bahamagara ingabo zose, ziraterana.

17 Bamwambika impuzu y'agahama, batsiba igitsibo c'amahwa, bakimwambika mu mutwe;

18 batangura kumuramutsa bati: "Ndagize bwakeye, Mwami w'Abayuda.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

19Bamukubita irenga mu mutwe, bamuvuma amate, barapfukama, bamukomera amashi.

20Bamaze kumucurira, bamwambura ya mpuzu y'agahama, bamwambika impuzu ziwe, bamurengana irembo bamushoreye kumubamba.

21Bafata umuntu ahita, Simoni Umunyakurene, avuye mu misozi, ni se wa Alekisandero na Rufo, ngo amutwaze umusaraba.

22Bamushikana Yesu ahitwa i Gologota, risobanurwa ngo ahantu h' agahanga.

23Bamuha umuvinyu uvanze n'umuti w'umururazi, ntiyawunywa.

24Baramubamba, bagabura impuzu ziwe, barazipfindira, ngo bamenye iyo umuntu wese atwara.

25Igihe babamba Yesu zari isaha zitatu.

26Icandiko c'ikirego candikwa hejuru yiwe ngo UMWAMI W'ABAYUDA.

27Kandi babambana na we abambuzi babiri, umwe i buryo bwiwe, uwundi i bubamfu.

[ 28Nuko ivyanditswe birashika, ngo Yaharuranywe n'abanyavyaha. ]

29Abahahita baramucurira, bazunguza imitwe bati: "Yo, wewe usambura urusengero, ukarwubaka mu misi itatu,

30ni wikize, wimanure ku musaraba.”

31N'abaherezi bakuru bamucurira batyo, banwengurana n'abahinga b'ivyanditswe bati: "Yakijije abandi, we ntashobora kwikiza;

32Kristo Umwami w'Abisirayeli ni yimanure ku musaraba ubu nyene, tubibone twizere." "N'abari babambanywe na we na bo baramutuka.

33Maze isaha zitandatu zishitse, ubwirakabiri bukorana mu gihugu cose, bushitsa kw'isaha y'icenda.

34Kw'isaha y'icenda Yesu asemerera n'ijwi rirenga ati:" "Eloi, Eloi, lama sabakatani?" Risobanurwa ngo Mana yanje, Mana yanje, ni igiki kikumpebesheje?

35Maze bamwe mu bahahagaze bavyumvise baravuga bati: "Umve, ahamagaye Eliya.”

36Umwe arirukanga, yakira sipongo, ayuzuza inkarisha, ayirungikisha irenga; arayimusomesha ati: "Hinge turabe ko Eliya yoza kumubambura.”

37Maze Yesu avuga n'ijwi rirenga, aracikana.

38Igihuzu gikingira ahera cane h'urusengero gitantamukamwo kubiri, uhereye hejuru ugashitsa hasi.

39Intwazangabo y'abasoda ijana yari ihahagaze bahanganye, ibonye acikanye atyo, iravuga ati: "Ni ivyo ukuri, uwu muntu yari Umwana w'Imana.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

40Hariho n'abagore bari kure babiraba, muri bo harimwo Mariya Magadalene, na Mariya nyina wa Yakobo mutoya na Yose, harimwo na Salome.

41Abo bagore, aho yaba i Galilaya, baramukurikira bakamukorera; kandi hariho n'abandi bagore benshi bari baduganye na we i Yerusalemu.

42Bugorovye, kuko wari umusi wo Kwitegura, ni wo musi utangurira isabato,

43haza Yosefu w'i Arimataya, umushingantahe w'icubahiro, kandi na we yari areretse ubwami bw'Imana, ararinduka aja kuri Pilato, asaba ikiziga ca Yesu.

44Ariko Pilato biramutangaza ko yoba amaze gupfa; ahamagaza ya ntwazangabo y'abasoda, ayibaza yuko amaze umwanya apfuye.

45Maze yumvise ivyo iyo ntwazangabo imubwiye, aha Yosefu ikiziga.

46Agura impuzu yera, arakibambura akizingira muri ino mpuzu, agishira mu mva yimbwe mu bitandara, atembagaza ikibuye acugaza umuryango w'imva.

47Mariya Magadalene na Mariya nyina wa Yose babona aho ahambwe.

## Mariko 16

1Maze isabato ishize, Mariya Magadalene, Mariya nyina wa Yakobo na Salome bagura ibimota neza, ngo baje kubimusiga.

2Kandi mu mutwenzi ku wa mbere w'imisi indwi barazinduka, bashika ku mva izuba rirashe.

3Barabazanya bati: "Ni nde yodutembagariza ikibuye co ku munwa w'imva?”

4Maze bunamuye amaso babona ca kibuye catembagajwe cavuyeho, kandi cari kinini cane.

5Maze binjiye mu mva, babona umusore yicaye mu ruhande rw'i buryo, yambaye imvune yera, barumirwa cane.

6Arababwira ati: "Nta co mwumirwa, ndazi yuko murondera Yesu Umunyanazareti umwe yabambwa; none yazutse, ntari hano; ehe, raba aho bari bamushize !”

7Ariko ni mugende mubwire abigishwa biwe na Petero muti: "Arabitangira imbere kuja i Galilaya, iyo ni ho muzomubonera, nk'uko yababwiye." “

8Bava mu mva, barahunga, kuko bari bafashwe n'ubwoba bwinshi n'akumiza, maze ntibagira ico babwira umuntu n'umwe, kuko batinye. ]

9Yesu amaze kuzuka mu mutwenzi ku wa mbere w'imisi indwi, abanza kwiyereka Mariya Magadalene, uwo yasenzemwo abadayimoni indwi.

10Uwo aragenda, abibarira ababana na we, asanga bababaye barira.

11Na bo bumvise ko ari muzima, kandi ko yamwiboneye, ntibavyemera.

© 2007 Bible Society of Burundi.

12Hanyuma y'ivyo yiyereka babiri muri bo, afise iyindi shusho, bagenda baja mu misozi.

13Na bo nyene baragenda, babibwira abasigaye, maze ntibabemerera na bo.

14Hanyuma yiyereka bamwe icumi n'umwe, bicaye bariko bararya, abagaya ukutizera kwabo no gukomantara kw'imitima yabo, kuko batemereye abamubonye, amaze kuzuka.

15Arababarira ati:" "Mugende muje mu bihugu vyose, mubwire abaremwe bose ubutumwa bwiza.

16Uwizera akabatizwa azokizwa, ariko uwutizera azotsindwa n'urubanza.

17Kandi ibimenyetso bizokwama biboneka ku bizera ni ibi: bazosenda abadayimoni mw'izina ryanje; bazovuga indimi nshasha;

18bazofata inzoka; ni banywa ikintu cica, nta co kizobagira na gatoya; bazorambika ibiganza ku barwaye, bakire.”

19Kandi Umwami Yesu ahejeje kubibabarira, aduzwa mw'ijuru, avyagira i buryo bw'Imana.

20Abo bavayo, bigisha hose, Umwami Yesu akorana na bo, ijambo ryiwe arishingishiriza intahe ibimenyetso birikurikira. Amina. ]

© 2007 Bible Society of Burundi.

# Luka

## Luka 1

1Abantu benshi bagerageje kwandika amajambo adonda ivyabaye muri twebwe,

2nk'uko twabirazwe n'abahereye ubwa mbere ari ivyabona vyavyo n'abakozi b'ijambo ry'Imana.

3Nuko nanje, mpejeje gukurikiranya vyose neza mpereye ku vya mbere, nabonye ko ari vyiza kubikwandikira uko bikurikirana, wewe Teyofilo umwubahwa,

4kugira ngo umenye neza yuko amajambo wigishijwe ari ayo ukuri adakekeranywa.

5Ku butware bwa Herode, umwami w'i Yudaya, hariho umuherezi yitwa Zakariya, wo mu mutigiri wa Abiya, kandi yarafise umugore wo mu nzu ya Aroni, yitwa Elisabeti.

6Bompi bagororoka imbere y'Imana, bagendera mu vyagezwe n'amabwirizwa vy' Umwami Imana vyose, batagawa.

7Ariko ntibagira umwana, kuko Elisabeti yari ingumba, kandi bompi bari bageze mu zabukuru.

8Maze yariko arakora igikorwa c'ubuherezi imbere y'Imana, uko bagenda bakurikirana;

9kandi nk'uko umugenzo w'abaherezi wari uri, ni we yari yatoranijwe n'ubupfindo kwinjira ahera h'urusengero rw'Umwami Imana, guturira imibavu.

10Kandi ishengero ryose ry'ubwo bwoko ryariko rirasengera hanze mu gihe co guturira.

11Maze umumarayika w'Umwami Imana aramwiyereka, ahagaze i buryo bw'igicaniro baturiririrako imibavu.

12Zakariya amubonye ahagarika umutima, aterwa n'ubwoba.

13Umumarayika aramubwira ati: "Nta co utinya, Zakariya, kuko ivyo wasavye vyumviswe, umugore wawe Elisabeti azokuvyarira umuhungu, uzomwite Yohana.

14Uzonezerwa, uzohimbarwa, kandi benshi bazonezererwa ukuvuka kwiwe;

15kuko azoba mukuru mu maso y'Umwami Imana; ntazonywa umuvinyu canke ikiboreza na kimwe; azokwuzuzwa Mpwemu Yera, ahereye ku kuva mu nda ya nyina,

16kandi azogarura benshi bo mu Bisirayeli bumvire k'umwami Imana yabo.”

17Azoyiza imbere ari n'umutima wa Eliya n'ubushobozi bwiwe, ngo ahuze imitima y'abavyeyi n'abana, n'intabarirwa azisubize ku bwenge bw'abagororotsi, ategurire Umwami Imana ubwoko burorane.

18Zakariya abaza umumarayika ati: "Ivyo nzovyerekwa n'iki, ko ndi umutama, n'umugore wanje akaba ageze mu zabukuru?”

© 2007 Bible Society of Burundi.

19Umumarayika aramwishura ati: "Ndi Gaburiyeli, nama mpagaze mu maso y'Imana, kandi natumwe kubonana nawe no kukubwira ubwo butumwa bwiza.

20Umve, uragobwa ururimi, kandi ntuzoshobora kuvuga, kugeza ku musi ivyo bizoberako, kuko utemeye ijambo ryanje, rizoshika mu gihe caryo."

21Abantu bari barorereye Zakariya batangazwa n'uko atevye ahera h'urusengero;

22Maze asohotse ntiyagira ico ashobora kuvugana na bo, bamenya yuko hari ico yerekewe ahera h'urusengero: arabagereraniriza, akomeza kuba ikiragi.

23Maze imisi yo gukora kwiwe ishize, asubira i we.

24Iyo misi ishize, umugore wiwe Elisabeti asama inda, atinya abantu amezi atanu

25ati: "Uku ni ko Umwami Imana inkoreye ikanteturura mu bantu mu misi yandabiyemwo."

26Kandi mu kwezi kwa gatandatu, umumarayika Gaburiyeli atumwa n'Imana mu gisagara c'i Galilaya citwa Nazareti,

27ku mwigeme asabwe n'umugabo yitwa Yosefu, wo mu nzu ya Dawidi, izina ry'iyo nkumi ni Mariya.

28Yinjira aho ari, aramubwira ati: "Ni amahoro, ugiriwe ubuntu, Umwami Imana ari kumwe nawe."

29Ariko we ahagarika umutima cane kubwo iryo jambo, yibaza iyo ndamukanyo iyo ari yo.

30Umumarayika aramubwira ati: "Nta co utinya Mariya, kuko ugiriwe ubuntu n'Imana.

31Umve, uzosama inda, uvyare umuhungu, kandi uzomwite YESU.

32Azoba mukuru, azokwitwa Umwana w'Iyisumbavyose, kandi Umwami Imana azomuha intebe y'ubwami ya sekuruza Dawidi,

33ahangame mu nzu ya Yakobo ibihe bidashira; ubwami bwiwe ntibuzogira iherezo."

34Mariya abaza umumarayika ati: "Ivyo bizobaho bite, ko ntararongorwa?"

35Umumarayika aramwishura ati: "Mpwemu Yera azokuzako, ubushobozi bw'Iyisumbavyose buzokuzako usame inda. Ni co gituma uwera azovuka azokwitwa Umwana w' Imana.

36Kandi umve, Elisabeti mwene wanyu na we atwaye inda y'umuhungu mu butamakazi bwiwe, uwitwa ingumba uku ni ukwezi kwiwe kwa gatandatu;

37kuko ata jambo rivuye ku Mana ribura ububasha."

38Mariya aramubwira ati: "Ehe ndi umusavyi w'Umwami Imana, bimbere uko ijambo ryawe rivuzwe." " Maze umumarayika ava aho ari, aragenda.

© 2007 Bible Society of Burundi.

39Muri iyo misi Mariya aritegura, agenda yihuta, aja mu misozi mu gisagara co mu Buyuda,

40yinjira mu nzu kwa Zakariya umugabo wa Elisabeti.

41Maze Elisabeti yumvise indamukanyo ya Mariya, inda irikina mu nda, Elisabeti yuzuzwa Mpwemu Yera,

42avuga n'ijwi rirenga ati: " "Mu bagore urahiriwe, n'inda yo mu nda yawe irahiriwe.

43Kandi iryo teka ndaritewe ni iki kubona nyina w'umwami wanje aza kundamutsa?

44Kuko ijwi ry'indamukanyo yawe ryinjiye mu matwi yanje, inda igakinagizwa muri jewe n'umunezero.

45Kandi urahiriwe wewe wizeye, kuko ivyo wabwiwe n'Umwami Imana bizoshika.”

46Mariya aravuga ati: "Ubugingo bwanje butazira Umwami Imana,

47Umutima wanje unezererewe Imana Umukiza wanje.

48Kuko yabonye jewe umugurano wayo ndi nyarucari, Kandi uhereye none, abo ibihe vyose bazonyita umuhirwe.

49Kuko Iyo ubushobozi inkoreye ibikomeye, Kandi izina ryayo ni iryera.

50Imbabazi zayo ziri ku bayubaha uhereye ubu ugashitsa ibihe bidashira.

51Yerekanishije ubushobozi ukuboko kwayo, Yasabagije abibona mu vyo biyumvira mu mitima yabo.

52Yirukanye abaganza ku ntebe zabo, Yashize hejuru abakene bo hasi.

53Abashonje yabahagije ivyiza, Yirukanye abatunzi bagenda imbokoboko.

54Kubwo imbabazi zayo yatabaye Isirayeli umusavyi wayo,

55Nk'uko yari yarabibwiye ba sogokuruza, Ko azozigirira Aburahamu n'uruvyaro rwiwe, ibihe bidashira." “

56Kandi Mariya amarana na we amezi nk'atatu, asubira i wabo.

57Igihe co kuvyara kwa Elisabeti kirashika, avyara umuhungu. “

58Ababanyi biwe n'incuti ziwe bumva yuko Umwami Imana yamugiriye imbabazi nyinshi, banezeranwa na we.

59Ku musi w'umunani baza guhimbura umutwe w'igikoba c'ubugabo c'irondoka c'uwo mwana, bagomba kumwitiranya na se Zakariya.

60Nyina arababwira ati: "Oya, ni yitwe Yohana.”

61Baramubwira bati: "Mu muryango wanyu ko ata witwa iryo zina.”

62Bagereraniriza se, bamubaza uko agomba ko yitwa.

© 2007 Bible Society of Burundi.

63Yaka ico kwandikako, arandika ati: "Izina ryiwe ni Yohana.”

64Bose baratangara. Uwo mwanya akanwa kiwe karazibuka, n'ururimi rwiwe
ruragobodoka, aravuga, ashima Imana.

65Ababanyi babo bose baterwa ni ubwoba. Ayo majambo yose akwira mu misozi yose
y'i Yudaya.

66Abavyumvise bose babishira mu mitima yabo bati: "Mbega none uwo mwana azoba
umuntu ki?" Kuko ukuboko kw'Umwami Imana kwari kumwe na we.

67Se Zakariya yuzuzwa Mpwemu Yera, avugishwa n'Imana

68ati: "Umwami Imana ashimwe, Imana y'Abisirayeli, Kuko igendeye abantu bayo,
ikabacungura;

69Kandi iduhagurukirije umukiza akomeye Mu nzu ya Dawidi umusavyi wayo,

70Nk'uko yavugiye mu kanwa k'abera yavugisha, bahereye mu bihe vya kera,

71Ngo idukize abansi bacu n'amaboko y'abatwanka bose;

72Kandi igirire ba sogokuruza imbabazi, Yibuke isezerano ryayo ryera,

73Indahiro yarahiye sogokuruza Aburahamu,

74Ko izoduha gukizwa amaboko y'abansi bacu, Tukayisenga ata bwoba,

75Turi abera tugororoka mu maso yayo imisi yacu yose.

76Kandi nawe, mwana, uzokwitwa umuntu avugishwa n'Iyisumbavyose, Kuko
uzokwitangira imbere y'Umwami Imana gutegura inzira ziwe;

77Kumenyesha abantu biwe agakiza, Ko ari uguharirwa ivyaha vyabo,

78Kubwo umutima w'imbabazi w'Imana yacu, Ni wo uzotuma umutwenzi utugendera,
uvuye mw'ijuru,

79Ngo urasire abicaye mu mwiza no mu gitutu c'urupfu, Urongorere ibirenge vyacu
mu nzira y'amahoro.

80Nya mwana arakura, agwiza inkomezi z'umutima, aba mu bugaragwa kugeza umusi
yerekeweko Abisirayeli.

## Luka 2

1Muri iyo misi icagezwe kiva kwa Kayisari Augusito, ngo abo mw'isi bose bandikwe.

2Ukwo ni kwo kwandikwa kwa mbere kwabayeho Kureniyo akiri icegera ca Kayisari
i Siriya.

3Bose baja kwiyandikisha, umuntu wese aja mu gisagara cabo.

4Yosefu na we ava i Galilaya mu gisagara c'i Nazareti, aja i Yudaya mu gisagara ca
Dawidi, citwa Betelehemu, kuko yakomotse mu nzu ya Dawidi mu muryango wiwe;

© 2007 Bible Society of Burundi.

5aja kwiyandikishanya na Mariya uwo yakoye, yari akuriwe.

6Bakiriyo, igihe ciwe co kuvyara kirashika.

7Avyara umuhungu w'imfura, amuzingirako impuzu y'uruyoya, amuryamika mu bwato bw'inka, kuko bari babuze umwanya mu ndaro.

8Muri iyo ntara hari abungere barara mu gahinga barariye umukuku w'intungwa zabo.

9Umumarayika w'Umwami Imana ahagarara i ruhande yabo, ubwiza bw'Umwami bubakayanganira irya n'ino, baterwa n'ubwoba bwinshi.

10Umumarayika arababwira ati: "Nta co mutinya, umve ndababarira ubutumwa bwiza bw' akanyamuneza kenshi kazoba ku bwoko bwanyu bwose.

11Uwu musi Umukiza abavukiye mu gisagara ca Dawidi, ni we Kristo Umwami.

12Iki ni co kimenyetso canyu, murasanga umwana w'uruyoya azingiriweko impuzu y'uruyoya, aryamitswe mu bwato bw'inka."

13Uwo mwanya hamwe n'uwo mumarayika haboneka ingabo nyinshi zo mw'ijuru, zihimbaza Imana

14ziti: "Icubahiro ni kibe ku Mana ahasumba ijuru, No mw'isi amahoro abe mu b'inezererwa."

15Ba bamarayika bahejeje kuva aho bari, basubiye mw'ijuru, nya bungere baravugana bati: "Ingo rero tuje i Betelehemu, turabe ico kintu cabayeyo, ico Umwami Imana atumenyesheje."

16Bagenda banyaruka, babona Mariya na Yosefu n'uruyoya rubikiriwe mu bwato bw'inka.

17Babibonye bababarira ijambo babwiwe kuri uwo mwana.

18Abavyumvise bose batangazwa n'ivyo ba bungere bababwiye.

19Ariko Mariya abika ayo majambo yose, ayiyumvira mu mutima wiwe.

20Maze ba bungere bahindukira bahimbaza Imana, bayishimira ivyo bumvise vyose n'ivyo babonye, nk'uko babibwiwe.

21Kandi imisi munani iheze hageze ko bahimbura igikoba c'ubugabo, bamwita YESU, rya zina ryavuzwe n'umumarayika, atarasamwa inda.

22Imisi yo guhumanurwa kwabo iheze, nk'uko ivyagezwe vya Mose biri, bamujana i Yerusalemu kumushikanira Umwami Imana,

23nk'uko vyanditswe mu vyagezwe n'Umwami Imana, ngo Umuhungu wese w'icavutse ubwa mbere azokwitwe uwera k'Uhoraho;

24kandi ngo batange ikimazi c'intunguru zibiri canke inuma zibiri nk'uko vyavuzwe mu vyagezwe n'Umwami Imana.

© 2007 Bible Society of Burundi.

25Kandi i Yerusalemu hari umuntu w'umugororotsi yubaha Imana yitwa Simeyoni kandi Mpwemu Yera yari kuri we. Yari arorereye uguhumurizwa kw'Abisirayeli.

26Yari yarabwiwe na Mpwemu Yera yuko atazopfa, atarabona Kristo w'Umwami Imana.

27Ajanwa na Mpwemu mu rusengero; abavyeyi bajanye uwo mwana Yesu ngo bamugenze nk'uko umugenzo w'ivyagezwe wari uri,

28aramwakira, aramukikira, ashima Imana

29ati: "Databuja, noneho urasezeye umusavyi wawe amahoro, Nk'uko wavuze;

30Kuko amaso yanje abonye agakiza kawe

31Ako wateguye mu maso y' amoko yose,

32Ngo kabe umuco wakira amahanga, No kuba ubwiza bw'abantu bawe b'Abisirayeli.

33Se na nyina batangazwa n'ayo majambo avuzwe kuri we.”

34Simeyoni arabahezagira, abwira nyina Mariya ati: "Umve, uwu ashiriweho kugira ngo benshi mu Bisirayeli bagwe, benshi bavyuke, kandi abantu bazomupfa,

35kugira ngo ivyiyumviro vy'imitima myinshi bizoseruke. Kandi nawe, umubabaro uzokubabaza mu mutima nk'uwucumiswe n'inkota.”

36Kandi hariho Ana, uwavugishwa n'Imana, umukobwa wa Fanuweli, wo mu muryango wa Asheri, yari umutamakazi wa kera, yabanye n'umugabo wiwe imyaka indwi, uhereye ku kurongorwa kwiwe.

37Yamaze imyaka mirongo umunani n'ine ari umupfakazi, ntiyava mu rusengero gusenga, yisonzesha yinginga, ku murango no mw'ijoro. “

38Ako kanya aca araza, ashima Imana, avuga ivya Yesu, abibwira abari barorereye ugucungurwa kw'i Yerusalemu bose.

39Baheraheje vyose nk'uko ivyagezwe n'Umwami Imana bivuga, basubira i Galilaya mu gisagara cabo i Nazareti.

40Kandi uno mwana arakura, agwiza inkomezi, yuzuzwa ubwenge, ubuntu bw'Imana bwari kuri we. “

41Uko umwaka uheze, abavyeyi biwe baja i Yerusalemu mu misi mikuru ya Pasika.

42Nuko amaze imyaka icumi n'ibiri avutse, baraduga, nk'uko umugenzo w'iyo misi mikuru wari uri.

43Baheraheje ivyo iyo misi, barataha, uwo muhungu Yesu asigara i Yerusalemu, abavyeyi biwe ntibabimenya.

44Ariko bibwiye yuko ari mw'ikoraniro ry'abo bagendanye, bagenda urugendo rw'umusi wose, maze bamurondera mu ncuti no mu bo bazinanyi.

© 2007 Bible Society of Burundi.

45Bamubuze basubira i Yerusalemu bamurondera.

46Hashize imisi itatu, bamubona mu rusengero yicaye mu bigisha hagati, abumva, kandi ababaza.

47Abamwumvise bose batangazwa n'ubwenge bwiwe n'ivyo abishura.

48Bamubonye baratangara. Nyina aramubaza ati: "Mwananje, ni iki catumye utugirira utyo?" Urabona twe na so aho twakurondereye tubabaye.

49Arababaza ati: "Ni igiki cabateye kundondera?" Ntimwari muzi yuko bikwiye ko mba kwa Data?

50Ntibamenya iryo jambo ababwiye.

51Amanukana na bo, aja i Nazareti, yama abumvira. Nyina abika ayo majambo yose mu mutima wiwe.

52Kandi Yesu agwiza ubwenge, gukura no gushimwa n'Imana n'ahantu.

## Luka 3

1Mu mwaka ugira icumi na gatanu Kayisari Tiberiyo ari ku butware, Pontiyo Pilato ari icegera ciwe i Yudaya, Herode na we ari umwami w'i Galilaya, Filipo mwene se ari umwami w'intara yo muri Ituraya n'i Tirakoniti, Lusaniya ari umwami w'i Abilene,

2Anasi na Kayafa ari abaherezi bakuru, muri uwo mwaka ijambo ry'Imana rishika kuri Yohana umwana wa Zakariya, ari mu bugaragwa.

3Aja mu gihugu cose giherereye kuri Yorodani, yigisha abantu ukubatizwa kwo kwihana ngo bakurweko ivyaha;

4nk'uko vyanditswe mu gitabo c'amajambo y'uwavugishwa n'Imana Yesaya, ngo ijwi ry'uwusemererera mu bugaragwa Ati: "Ni mutegure inzira y' Uhoraho, Mugorore utuyira acamwo twiwe.”

5Umwonga wose uzokwuzuzwa, N'umusozi wose n'akarambi bizoringanizwa, Ibigoramye bizogororoka, N'inzira zirimwo udusozisozi zizosenwa.

6Maze abafise umubiri bose, bazobona agakiza k'Imana.

7Nuko abwira ishengero ryari rivuye i wabo rije kubatizwa na we ati: "Mwa bana b'inzoka mwe, ni nde yababuriye ngo muhunge ishavu buzoza?”

8Nuko mwame imbuto zikwiranye n'ukwihana; kandi ntimutangure kwiyumvira mu mitima ngo mufise Aburahamu wanyu, ni we sogokuruza. Ndababwira yuko aya mabuye Imana ishobora kuyavyuramwo abana ba Aburahamu.

9Ariko incabiti igira ice ibitsina vy'ibiti; nuko rero, igiti cose kitama ivyiza kiracibwa, kigatererwa mu muriro.

10Ishengero riramubaza riti: "None tugire dute?”

© 2007 Bible Society of Burundi.

11Arabishura ati: "Uwufise impuzu zibiri ni ahe imwe uwutarifise, n'uwufise ivyokurya ni agire atyo."

12Kandi haza n'abatozakori kubatizwa, baramubaza bati: "Mwigisha tugire dute?"

13Arabishura ati: "Ntimugatoze abantu ibiruta ivyo mwagezwe."

14N'abasoda baramubaza bati: "Tweho tugire dute?" Arabishura ati: "Ntihakagire umuntu mwambura ivyiwe canke mumwagirize ibinyoma, kandi ingero zanyu zibabumbe."

15Kandi abantu bari barorereye ibizoba, bose bakibaza mu mitima ngo kumbure Yohana yoba Kristo.

16Yohana ababarira bose ati: "Ni ukuri jeho ndababatirisha amazi, ariko hazoza uwundusha ubushobozi, ntibimbereye no gupfundurura utugozi tw'ibirato vyiwe; uwo azobabatiza muri Mpwemu Yera no mu muriro."

17Urutaro rwiwe ruri mu kuboko kwiwe, ngo akubure imbuga yiwe neza, yimburire ingano mu kigega ciwe, maze umuguruka awuturire mu muriro utazima.

18Kandi abarira abantu ubutumwa bwiza, abahanurisha ibindi vyinshi.

19Maze ahishutse umwami Herode ku vya Herodiya umugore wa mwene se, no ku vy'ibindi bibi vyose Herode yakoze.

20Kuri ivyo vyose Herode agerekako iki, yugaranira Yohana mw'ibohero.

21Nuko abantu bose babatijwe, na Yesu ahejeje kubatizwa, ariko arasenga, ijuru rirakinguruka,

22Mpwemu Yera aramanuka amugwako, afise ishusho y'umubiri usa n'inuma; ijwi riva mw'ijuru riti: "Ni wewe Mwana wanje nkunda ukampimbara."

23Aho Yesu yatangura kwigisha, yari amaze imyaka nka mirongo itatu avutse, kandi biyumvira ko yari umwana wa Yosefu, Yosefu umwana wa Heli,

24Heli umwana wa Matati, Matati umwana wa Lewi, Lewi umwana wa Meluki, Meluki umwana wa Yanayi, Yanayi umwana wa Yosefu,

25Yosefu umwana wa Matatiya, Matatiya umwana wa Amosi, Amosi umwana wa Nahumu, Nahumu umwana wa Esili, Esili umwana wa Nagayi,

26Nagayi umwana wa Mati, Mati umwana wa Matatiya, Matatiya umwana wa Semeyini, Semeyini umwana wa Yoseki, Yoseki umwana wa Yoda, Yoda umwana wa Yohanani,

27Yohanani umwana wa Resa, Resa umwana wa Zerubabeli, Zerubabeli umwana wa Shalutiyeli, Shalutiyeli umwana wa Neri,

28Neri umwana wa Meluki, Meluki umwana wa Adi, Adi umwana wa Kosamu, Kosamu umwana wa Elumadamu, Elumadamu umwana wa Eri, Eri umwana wa Yesu,

© 2007 Bible Society of Burundi.

29Yesu umwana wa Eliyezeri, Eliyezeri umwana wa Yorimu, Yorimu umwana wa Matati, Matati umwana wa Lewi,

30Lewi umwana wa Simeyoni, Simeyoni umwana wa Yuda, Yuda umwana wa Yosefu, Yosefu umwana wa Yonamu, Yonamu umwana wa Eliyakimu, Eliyakimu umwana wa Meleya,

31Meleya umwana wa Mena, Mena umwana wa Matata, Matata umwana wa Natani, Natani umwana wa Dawidi,

32Dawidi umwana wa Isayi, Isayi umwana wa Obedi, Obedi umwana wa Bowazi, Bowazi umwana wa Salumoni, Salumoni umwana wa Nahasoni,

33Nahasoni umwana wa Aminadabu, Aminadabu umwana wa Aruni, Aruni umwana wa Hesironi, Hesironi umwana wa Peresi,

34Peresi umwana wa Yuda, Yuda umwana wa Yakobo, Yakobo umwana wa Isaka, Isaka umwana wa Aburahamu, Aburahamu umwana wa Tera, Tera umwana wa Nahori,

35Nahori umwana wa Serugi, Serugi umwana wa Reyu, Reyu umwana wa Pelegi, Pelegi umwana wa Eberi, Eberi umwana wa Shela, Shela umwana wa Kayinani,

36Kayinani umwana wa Arupakisadi, Arupakisadi umwana wa Shemu, Shemu umwana wa Nowa,

37Nowa umwana wa Lameki, Lameki umwana wa Metusela, Metusela umwana wa Henoki, Henoki umwana wa Yeredi, Yeredi umwana wa Mahalaleyeli,

38Mahalaleyeli umwana wa Kayinani, Kayinani umwana wa Enoshi, Enoshi umwana wa Seti, Seti umwana wa Adamu, Adamu w'Imana.

## Luka 4

1Yesu yuzuzwa Mpwemu Yera, ava kuri Yorodani, agendagendeshwa mu bugaragwa na Mpwemu, amarayo imisi mirongo ine,

2ageragezwa n'Umwansi Satani. Kandi muri iyo misi nta co yariye; ishize arasonza.

3Umwansi aramubwira ati: "Ni waba uri Umwana w'Imana, bwira iri buye ricike umutsima.”

4Yesu aramwishura ati: "Vyanditswe ngo Umuntu ntatungwa n'umutsima gusa.”

5Aramudugana, amwereka ubwami bwose bwo mw'isi mu kanya gato.

6Umwansi aramubwira ati: "Ndaguha ubu bubasha bwose n'ubwiza bwabwo, kuko jewe nabuhawe, kandi ndabuha uwo ngomba wese.

7Nuko ni wampfukamira, ukansenga, ubwo bwose buraba ubwawe.”

8Yesu aramwishura ati: "Vyanditswe ngo Usenge Uhoraho, Imana yawe, abe ari yo usaba yonyene.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

9Amujana i Yerusalemu, amuhagarika mu gatwe k'urusengero, aramubwira ati: "Ni waba uri Umwana w'Imana, ikororere hasi,

10kuko vyanditswe, ngo azokuragiza abamarayika biwe, ngo bakuzigame;

11kandi ngo Bazokuramira mu maboko yabo, Ngo kumbure ntutsitare kw'ibuye.”

12Yesu aramwishura ati: "Vyaravuzwe, ngo ntukagerageze Uhoraho, Imana yawe." “

13Umwansi arangije ivyo amugerageresha vyose, amara igihe amuretse.

14Maze Yesu asubira i Galilaya, ari n'ubushobozi bwa Mpwemu, inkuru yiwe ikwira mu gihugu cose kihakikije.

15Yigishiriza mu nsengero z'Abayuda zabo, bose baramushima.

16Aja i Nazareti, iyo yakuriye; ku musi w'isabato yinjira mu rusengero rw'Abayuda, nk'uko yamenyereye, ava hasi ngo asome.

17Bamuha igitabo c'uwavugishwa n'Imana Yesaya, arakizingurura, abona ahantu handitswe, “

18ngo Mpwemu w'Uhoraho ari kuri jewe, Ni co catumye andobanuza amavuta kugira ngo mbwire aboro ubutumwa bwiza. Yantumye kumenyesha abarindwa ko barekuwe, N'impumyi ko zihumuka, No kubohora imitima iri mu kazitiro,

19No kumenyesha abantu umwaka wo kwemererwamwo n'Uhoraho.

20Azinga igitabo, agisubiza umusanzi w'inzu, aricara; abantu bose bari mu rusengero rw'Abayuda bamuhanga amaso.

21Atangura kubabwira ati: "Ivyo vyanditswe birashitse uwu musi, nk'uko amatwi yanyu yiyumviye.”

22Bose baramushima, batangazwa n'amajambo y'igikundiro avuye mu kanwa kiwe bati: "Mbega uwu si we umwana wa Yosefu?”

23Arababwira ati: "Ntimuzobura kuncirako uwu mugani muti: 'Muvuzi ni wivure.'" Ivyo twumvise vyose ko wakoreye i Kaperinawumu, ubikorere n'ino mu ntara y'i wanyu.

24Kandi avuga ati: "Ndababwire ukuri, Nta muntu avugishwa n'Imana yemerwa mu ntara y'i wabo.”

25Kandi ati: "Ni ivyo ukuri, hariho abapfakazi benshi mu Bisirayeli mu gihe ca Eliya, hamwe ijuru ryakingwa, imvura igatara imyaka itatu n'amezi atandatu, ikigoyi cinshi kigatera mu gihugu cose;

26yamara Eliya ntiyatumwa kuri n'umwe muri bo, ariko atumwa i Zarefati mu gihugu c'i Sidoni ku mugore w'umupfakazi.”

27Kandi hariho abanyamibembe benshi mu Bisirayeli mu gihe c'uwavugishwa n'Imana Elisa, ntihakizwa n'umwe muri bo, atari Namani Umusiriya. “

© 2007 Bible Society of Burundi.

28Abo mu rusengero rw'Abayuda bose bumvise ivyo banigwa n'ishavu,

29bava hasi, baramukwega bamukura mu gisagara cabo, bamujana ku manga y'umusozi wubatsweko igisagara cabo, ngo bamutembagarizeyo;

30ariko aca hagati muri bo, arigira.

31Aramanuka aja Kaperinawumu, igisagara c'i Galilaya: kandi ariko arabigisha kw'isabato,

32batangazwa n'inyigisho ziwe, kuko ijambo ryiwe ryari n'ububasha.

33Kandi mu rusengero rw'Abayuda hari umuntu yinjiwemwo n'impwemu ya dayimoni ahumanye, asemerera n'ijwi rirenga

34ati: " "Yo! Duhuriye hehe ga Yesu Munyanazareti? Uje kuduhonya? Ndakuzi uwo uri we, uri Uwera w'Imana.”

35Yesu aramuzibiza ati: "Hora, muvemwo." Dayimoni amutuye hasi hagati yabo, amuvamwo, atagize ico amugira.

36Bose baratangara, barabazanya bati: "Iryo ni ijambo ki? Kubwo ububasha n'ubushobozi afise, ategeka impwemu zihumanye zigasohoka." “

37Inkuru yiwe ikwira hose mu ntara ihakikije.

38Ava hasi, arasohoka ava mu rusengero rw'Abayuda, yinjira mu nzu kwa Simoni. Kandi inabukwe wa Simoni yari afashwe n'umururumbo ukomeye, baramumwingingira.

39Amuhagarara i ruhande, akankamira umururumbo, urazima; avyuka uwo mwanya, arabazimana.

40Kandi ku kirengazuba, abari bafise abarwaye bose barwaye indwara zitandukanye barabamuzanira. Abarambikako ibiganza umwumwe, arabakiza.

41Kandi n'abadayimoni bava muri benshi, basemerera bati: " "Uri Umwana w'Imana." Arabazibiza, ntiyabakundira ko bavuga, kuko bari bazi yuko ari Kristo.

42Kandi ijoro rikeye, arasohoka, aja mu gahinga; ishengero riramurondera, bashika aho ari, bageza kumubuza ngo ntave muri bo.

43Maze arababwira ati: "Nkwiye kuvuga ubutumwa bwiza bw'ubwami bw'Imana no mu bindi bisagara, kuko ari co natumwe.”

44Nuko avugira ijambo ry'Imana mu nsengero z'Abayuda y'i Galilaya.

## Luka 5

1Nuko ishengero ririko rirahita ryumva ijambo ry'Imana, yari ahagaze ku musenyi w'ikiyaga c'i Genesareti.

© 2007 Bible Society of Burundi.

2 Abona amato abiri aziritswe ku nkombe y'ikiyaga, ariko abarovyi bari bayavuyemwo, boza insenga.

3 Atambukira mu bwato bumwe, bwari ubwa Simoni, aramusaba ngo abwigizeyo buve ku nkombe gatoya; aricara, yigisha ishengero, ari mu bwato.

4 Ahejeje kuvuga, abarira Simoni ati: "Igira hagati, muterere insenga zanyu murobe.”

5 Simoni aramwishura ati: "Erega Mwigisha, twakesheje ijoro ryose twarushe, nta co twafashe; ariko ku bwo ijambo ryawe ndaterera insenga.”

6 Babigize, baroba ifi nyinshi cane, insenga zabo zigomba gucika.

7 Bakura abagenzi babo bari mu bundi bwato, ngo bazobafashe. Baraza, buzuza ubwato bwompi, bwagomba kwibira.

8 Ariko Simoni Petero abibonye yikubita imbere y'amavi ya Yesu ati: "Va aho ndi, Mugenzi, kuko ndi umunyavyaha.”

9 Kuko atangaye, n'abari kumwe na we bose, babonye ifi barovye.

10 Na Yakobo na Yohana abana ba Zebedayo na bo baratangara, bari bafatanije na Simoni. Yesu abwira Simoni ati: "Nta co utinya, kuva ubu uzoroba abantu. “

11 Bahejeje gushikana ubwato bwabo ku nkombe, basiga vyose, baramukurikira.

12 Ikindi gihe ari mu gisagara kimwe muri vyo, haza umuntu ajejeta imibembe. Abonye Yesu yikubita hasi yubamye, aramwinginga ati: " "Mugenzi, ukunze, woshobora kumpumanura.”

13 Agorora ukuboko, amukorako ati: "Ndakunze, humanuka." Imibembe ica imuvako.

14 Aramwihanikiriza ati: "Ntagire umuntu ubibarira mugabo genda, wiyereke umuherezi, utange ivyo uguhumanurwa kwawe, nk'uko Mose yabitegetse, bibe ikimenyetso kibabere icabona." “

15 Ariko inkuru yiwe irushiriza gukwira, ishengero ryinshi rikoranira kumwumva no gukizwa indwara zabo.

16 Ariko we yiherera mu bugaragwa, asenga.

17 Umusi umwe Yesu ariko arigisha, Abafarisayo n'abigisha ivyagezwe bari bicayeho, bavuye mu mihana yose y'i Galilaya, i Yudaya n'i Yerusalemu; kandi ubushobozi bw'Imana bwo gukiza indwara bwari muri we.”

18 Maze haza abagabo bazanye ikimuga, bagiteruye mu nderuzo, barondera ingene bacinjiza ngo bagishire imbere yiwe.

19 Babuze aho bocinjiriza ku bwo ishengero, burira hejuru ku nzu, bagicisha mu mategura ayisakaye, bacururutsa mu nderuzo hagati y'abantu imbere ya Yesu.

20 Abonye ukwizera kwabo, aravuga ati: "Ewe muntu, ivyaha vyawe urabihariwe.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

21Abahinga b'ivyanditswe n'Abafarisayo batangura kwiburanya bati: "Uwo ni nde arogose? Ni nde ashobora guharira ivyaha atari Imana yonyene?"

22Maze Yesu, amenye ivyo biburanya, arababaza ati: "Mwiburanya ibiki mu mitima yanyu?"

23Icoroshe ni ikihe ni ukuvuga nti: 'Uhariwe ivyaha vyawe;' canke ni ukuvuga nti: ' Vyuka ugende?'

24Ariko kugira ngo mumenye ko Umwana w'umuntu afise ububasha mw'isi bwo guharira ivyaha-" abwira ico kimuga ati: "Ndakubariye nti Vyuka, wikorere inderuzo yawe, utahe."

25Aca avyuka imbere yabo, yikorera inderuzo yari aryamyemwo, arataha, ahimbaza Imana.

26Bose barumirwa cane, bahimbaza Imana, baterwa n'ubwoba bwinshi bati: "Uwu musi tubonye ibitangaza."

27Ivyo bishize, arasohoka, abona umutozakori yitwa Lewi, yicaye aho yatoreza ikibuguro, aramubarira ati: "Nkurikira."

28Asiga vyose, ava hasi, aramukurikira.

29Lewi amuteguriza izimano ryinshi mu nzu yiwe; kandi hari abantu benshi b'abatozakori n'abandi bicaranye na bo basangira.

30Abafarisayo n'abahinga b'ivyanditswe bafatanye na bo bidodombera abigishwa ba Yesu bati: "Ni igiki gitumye musangira n'abatozakori n'abanyavyaha?"

31Yesu arabishura ati: "Abakomeye nta co bagombera umuvuzi, atari abarwaye.

32Sinaje guhamagara abagororotsi, ariko naje guhamagara abanyavyaha ngo bihane."

33Na bo baramubwira bati: "Abigishwa ba Yohana barisonzesha kenshi bagasenga, n'abo Abafarisayo ni uko, ariko abawe baririra, barinywera."

34Yesu arababaza ati: "Mbega mwoshobora mute kugera abatowe ngo bisonzeshe, bakiri kumwe n'umukwe?"

35Ariko hari imisi izoza; kandi umukwe ni yabakurwamwo, bazoca bisonzesha muri iyo misi.

36Kandi abacira umugani ati: "Ntawotabura ikiraka ku mpuzu nshasha, ngo acomeke ku mpuzu y'umushire. Uwogira atyo yoba atabuye nshasha, kandi ikiraka atabuye kuri nshasha nticomatana n'iyo umushire."

37Kandi nta wotara umutobe w'umuvinyu mu mikuza y'insato ibombotse; kuko umuvinyu woturitsa iyo mikuza, igashirira hasi, imikuza igapfa.

38Ariko igikwiye ni ugutara umutobe w'umuvinyu mu mikuza y'insato.

© 2007 Bible Society of Burundi.

39Kandi nta muntu yanyoye umuvinyu uhiye yogomba umutobe; kuko avuga ati: "Iyihiye ni yo nziza."

## Luka 6

1Kw'isabato agenda aca mu mirima y'ingano; abigishwa biwe bamyoza ingano, barazihekenya, bazivungavunze mu minwe.

2Bamwe mu Bafarisayo barababaza bati: "Ni igiki gitumye mukora ikizira gukorwa kw'isabato?"

3Yesu na we arababaza ati: "Nta ho murigera musoma ivyo Dawidi yakoze, aho yari ashonje, asonzanye n'abari kumwe na we;

4ingene yinjiye mu nzu y'Imana, akakira imitsima yagenewe gushikanirwa Imana, akayirya, akayihako n'abari kumwe na we, ari umuziro kuribwa, uretse abaherezi bonyene?

5Kandi arababwira ati: "Umwana w'umuntu ni Umwami w'isabato."

6Ku yindi sabato yinjira mu rusengero rw'Abayuda, arigisha; kandi hari umuntu anyunyutse ukuboko kw'i buryo.

7Abahinga b'ivyanditswe bo n'Abafarisayo baramugenza ngo barabe ko akiza kw'isabato, ngo baronke ingene bomurega.

8Na we amenya ivyo biyumvira; abarira uwo muntu anyunyutse ukuboko ati: "Va hasi, uhagarare hagati." Ava hasi, arahagarara.

9Yesu arababwira ati: "Ndababaze, mbega ivyemerwa ni ugukora ivyiza kw'isabato, canke ni ugukora ibibi; gukiza umuntu, canke kumwica?"

10Aberaguzamwo amaso bose, aramubarira ati: "Ramvura ukuboko kwawe." " Arabigira, ukuboko kwiwe kurakira.

11Ariko bo birabasaza rwose, baja inama y'ico bogira Yesu.

12Muri iyo misi avayo, aja ku musozi gusenga. Akesha ijoro asenga Imana.

13Ijoro rikeye, ahamagara abigishwa biwe, atoranyamwo icumi na babiri, abita intumwa.

14Simoni, uwo yise Petero, Andereya mwene nyina, Yakobo, Yohana, Filipo, Barutolomayo,

15Matayo, Toma, Yakobo umwana wa Alufayo, Simoni yitwa Zelote,

16Bari Yuda umwana wa Yakobo na Yuda Isikaryota yabaye umuguranyi. "

17Amanukana na bo, ahagarara ahateze, kandi hariho ishengero ryinshi ry'abigishwa biwe, n'ishengero ryinshi ry'abantu bavuye i Yudaya hose n'i Yerusalemu no mu gihugu co muri Tiro n'i Sidoni gihereranye n'ikiyaga kinini, baje kumwumva no gukizwa indwara zabo.

© 2007 Bible Society of Burundi.

18Kandi n'abababazwa n'impwemu zihumanye barakizwa.

19Kandi ishengero ryose rigerageza kumukorako, kuko ubushobozi bwamuvamwo bukababakiza bose.

20Yunamurira amaso abigishwa biwe arababwira ati: "Murahiriwe mwebwe aboro; kuko ubwami bw' Imana ari ubwanyu.

21Murahiriwe mwebwe mushonje ubu, kuko muzohazwa. Murahiriwe mwebwe murira ubu, kuko muzotwenga.

22Muzoba muhiriwe abantu ni babanka bakabaca, bakabatuka, bakanegura izina ryanyu nk'aho ari ribi, babahoye Umwana w'umuntu.

23Uwo musi muzonezererwe mwitere hejuru, kuko impera yanyu ari nini mw'ijuru; kuko ari ko ba sekuruza babo bagize abavugishwa n'Imana.

24Ariko muzobona ibara, mwebwe abatunzi; kuko muhejeje gutunganirwa.

25Muzobona ibara, mwebwe muhaze ubu; kuko muzosonza. Muzobona ibara, mwebwe mutwenga ubu; kuko muzoboroga murira.

26Muzobona ibara, aho abantu bose bazobashemagiza; kuko ari ko ba sekuruza babo bashemagije abigira abavugishwa n'Imana.

27Ariko mwebwe mwumviriza ndababwire: " Ni mukunde abansi banyu, mugirire neza ababanka."

28Muhezagire ababavuma, musabire ababagirira nabi.

29Uwugukubise mu musaya, umuhindukirize n'uwundi; uwukwaka umutamana, ntumwime n'ikanzu.

30Uwugusaba wese umuhe, uwunyaga ivyawe ntuzosubire kubimwaka.

31Kandi uko mugomba ko abantu babagirira, mube ari ko mubagirira namwe.

32Kandi ni mwakunda ababakunda, muzoshimwa iki? Kuko abanyavyaha na bo bagira batyo.

33Kandi ni mwagirira neza ababagirira neza, muzoshimwa iki? Kuko abanyavyaha na bo bagira batyo.

34Kandi ni mwagurana abo muziga ko bazobishura, muzoshimwa iki? Abanyavyaha na bo bagurana abandi banyavyaha, ngo bishurwe nk'ivyabo.

35Ariko mukunde abansi banyu, mubagirire neza, mugurane abantu, mutaziga ko muzokwishurwa; kandi impera zanyu zizoba nyinshi, namwe muzoba abana b'Iyisumbavyose; kuko igirira neza intashima n'ababi.

36Mugire imbabazi, nk'uko So agira imbabazi.

© 2007 Bible Society of Burundi.

37 Kandi ntimugahinyurire mu mitima yanyu, namwe mukazohinyurwa; kandi ntimugatsindishe, namwe mukazotsindishwa. Mubohore, namwe muzobohorwa. Mutange, namwe muzohabwa.

38 Ingero nziza, itsindagiye, inyingishe, isesekaye, ni yo bazobaha mu co muteze. Kuko ingero mugeramwo ari yo muzosubirizwamwo namwe.

39 Kandi abacira umugani ati: "Mbega impumyi yoshobora kujana iyindi mpumyi?" Zompi ntizogwa mu cobo?

40 Umwigishwa ntaruta umwigisha wiwe, ariko umwigishwa wese arangije azoba nk'umwigisha wiwe.

41 Urabira iki akabango kari mu jisho rya mugenzawe, ikigiga kiri mu jisho ryawe ntucitegereze?

42 Woshobora ute kubwira umuvukanyi wawe uti: "Zana muvukanyi ndagutosore ikigiga kiri mu jisho ryawe; nawe ubwawe nturabe ikigiga kiri mu jisho ryawe? Wa ndyarya we, banza witosore ikigiga kiri mu jisho ryawe, uheze ubone neza gutosora akabango kari mu jisho ry'umuvukanyi.

43 Kuko ata giti ciza cama ibibi, kandi nta giti kibi cama ivyiza.

44 Igiti cose kimenyekanira ku vyo camye. Nta bokwamura insukoni ku munyinya, canke inzabibu ku mukere.

45 Umunyangeso nziza akura ivyiza mw'itunga ryiza ryo mu mutima wiwe, n'umunyangeso mbi akura ibibi mw'itunga ribi. Ibibogaboga mu mutima ni vyo akanwa kiwe kavuga.

46 Kandi mumpamagarira iki ngo Mwami, Mwami; ntimukore ivyo mvuga?

47 Umuntu wese aza aho ndi, akumva amajambo yanje, akayakora, ndabereka uko asa.

48 Asa n'umuntu yubaka inzu, yimvye hasi cane, akubaka umushinge ku rutare. Maze umugezi wuzuye usurira kuri iyo nzu, ntiwashobora kuyinyiganyiza, kuko yubatswe neza.

49 Ariko uwumva, ntabikore, asa n'umuntu yubatse inzu ko ivu, atimvye umushinge; maze umugezi uyisurirako, ica irasenyuka, uguhomvoka kw'iyo nzu kwabaye ugukomeye.

## Luka 7

1 Yesu ahereje kubwira ishengero ayo majambo yose mu matwi y'abantu, aja i Kaperinawumu.

2 Hariyo intwazangabo y'abasoda ijana, umushumba wiwe akunda cane yari arwaye, ari ku mpfiro.

3 Yumvise inkuru ya Yesu, imutumako abashingantahe b'Abayuda kumwinginga, ngo aze gukiza umushumba wiwe.

© 2007 Bible Society of Burundi.

4Na bo bashitse aho Yesu ari, baramwinginga cane bati: "Birabereye ko umugirira utyo,

5kuko akunda ubwoko bwacu, n'urusengero rwacu ni we yarutwubakiye.”

6Yesu ajana na bo. Ashitse hafi y'inzu, ya ntwazangabo imutumako incuti ziwe ati: "Mugenzi, nturinde kwigora, kuko bitambereye ko winjira mu nzu yanje;

7ni co catumye niyumvira ko bitambereye ko noza aho uri. Ariko vuga ijambo gusa, uwo muhungu arakira.”

8Kuko nanje ndi umuntu agendera musi y'abanganza, mfise abasoda ntwara. Iyo mbariye umwe nti: "Genda," aragenda; n'uwundi nti: "Ngwino," akaza; nabarira umushumba wanje nti: "Kora iki," akagikora.

9Yesu yumvise ivyo, aramutangarira, ahindukirira ishengero rimukurikiye ati: "Ndababwire, Sinaribwabone ukwizera kungana gutyo no mu Bisirayeli." “

10Abatumwe basubiye mu nzu, basanga wa mushumba akomeye.

11Hashize igihe gitoya, aja mu gisagara citwa Nayini; abigishwa biwe n'ishengero ryinshi bajana na we.

12Ashitse hafi y'irembo ry'igisagara, hasokoroka abagiye guhamba umuntu, yari ikinege, kandi nyina yari umupfakazi. Abantu benshi bo muri ico gisagara bari kumwe na we bamuherekeje ku maziko.

13Umwami Yesu amubonye amutera akagongwe, aramubarira ati: " "Nta co urira.”

14Yigira hafi y'inderuzo, ayikorako, abari bayikoreye barahagarara. Aravuga ati: "Muhungu, ndakubariye nti: ' Vyuka.'“

15Uwari yapfuye aravyuka, aricara, atangura kuvuga; Yesu amuha nyina.

16Bose baterwa n'ubwoba, bahimbaza Imana bati: "Uwuvugishwa n'Imana ahambaye aserutse muri twebwe; kandi Imana igendeye abantu bayo." “

17Iyo nkuru yiwe ikwira i Yudaya hose no mu gihugu cose gihereranye na ho.

18Abigishwa ba Yohana bamudondera ivyo vyose.

19Yohana ahamagara babiri mu bigishwa biwe, abatuma ku Mwami Yesu ngo bamubaze ko ari wa wundi akwiye kuza, canke ko bitega uwundi.

20Abo bagabo bamushikiriye, baramubwira bati: " "Yohana Umubatizi yakudutumyeko, ngo tukubaze ko uri wa wundi canke ko twitege uwundi?”

21Muri ako kanya akiza benshi indwara n'ivyago n'ibisigo bibi; n'impumyi nyinshi arazihumura.

22Maze arabishura ati: "Ni mugende, mubarire Yohana ivyo mubonye n'ivyo mwumvise." Impumyi zirahumuka, abacumbagira bagenda neza, abanyamibembe

© 2007 Bible Society of Burundi.

barakizwa, ibipfamatwi birumva, abapfuye barazurwa, aboro barabwirwa ubutumwa bwiza.

23Kandi Hahiriwe uwo ivyanje bitazotsitaza.”

24Abatumwe na Yohana bagiye, atangura kubwira ishengero ivya Yohana ati: "Mwagiye mu bugaragwa kuraba iki?"Mbega ni irenga rihungabanywa n'umuyaga?

25Ariko mwagiye kuraba iki? Mbega ni umuntu yambaye impuzu nziza? Erega abambara impuzu zishajije n'abidibamiye baba mu ngo z'abami.

26Ariko mwajanywe no kuraba iki? Umuntu avugishwa n'Imana? Ego me ni vyo; kandi ndababwire, Aruta uwuvugishwa n'Imana cane.

27Uwo ni we yanditswe, ngo Umve, ngira ntume integuza yanje imbere y'amaso yawe, Ikuroranirize inzira imbere yawe.

28Ndababwire, Mu bavyawe n'abagore nta wuruta Yohana; ariko umutoya mu bwami bw' Imana aramuruta.

29Kandi abantu bose n'abatozakori bumvise Yohana bemeye ukugororoka kw' Imana, kuko babatijwe na Yohana.

30Ariko Abafarisayo n'abigisha ivyagezwe bibujije inama z'Imana, kuko batabatijwe na we.

31Nuko abantu b'iki gihe ndabagereranya ni iki, kandi basa ni igiki?

32Basa n'abana bicaye mw'isoko bahamagarana bati: 'Twavugije imyironge, ntimwatamba; twakomye induru, ntimwarira.’

33Yohana Umubatizi yaje atarya umutsima, atanywa umuvinyu, mugira muti: 'Ahagazweko na dayimoni.’

34Umwana w'umuntu yaje arya, anywa, mugira muti: 'Nguwu umukunzi w'inda kandi ari n'umunoho w'umuvinyu, incuti y'abatozakori n'abanyavyaha.’

35Kandi ubwenge bw'Imana bwerekanwa ko ari ubwo ukuri n'abana babwo bose.

36Maze umwe mu Bafarisayo aramuhamagara ngo amuzimane. Yinjira mu nzu y'uwo Mufarisayo, aricara ngo arye.

37Umugore wo muri ico gisagara, yari umunyavyaha, amenye yuko arira mu nzu y'uwo Mufarisayo, azana agacupa k'amavuta amota cane.

38Ahagarara inyuma yiwe, hafi y'ibirenge vyiwe, arira. Atangura kumutonyangiriza amosozi ku birenge, abihanaguza umushatsi wiwe. Arabisomagura, abisiga ya mavuta.

39Wa Mufarisayo yamuhamagaye abibonye, aribwira ati: "Uwu muntu iyo aba uwuvugishwa n'Imana, yari kumenya uwu mugore amukozeko, uko ari n'uko asa, ko ari umunyavyaha.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

[40]Yesu aramubwira ati: "Simoni, mfise ico ngomba kukubwira." Aramwishura ati: "Mbarira, Mwigisha.”

[41]Aramubwira ati: "Habaye umuntu yagurana, hariho abantu babiri bamufitiye umwenda. Umwe yari amufitiye idenariyo amajana atanu, uwundi mirongo itanu.

[42]Maze badafise ico kumwishura, azibahebera bompi. Mbega uwuzorushiriza kumukunda ni uwuhe?

[43]Simoni aramwishura ati: "Ngira ngo ni uwo yahebeye nyinshi." Na we aramubwira ati: "Uvuze ukuri.”

[44]Ahindukiriye wa mugore, abwira Simoni ati: "Urabona uwu mugore?" Ninjiye mu nzu yawe, ntiwampa amazi yo kwoga ibirenge; ariko uwu antonyangirije amosozi ku birenge, abihanaguza umushatsi wiwe.

[45]Ntiwansomye; ariko uwu uhereye aho ninjiriye ntiyasizeho kunsomagura ibirenge.

[46]Ntiwansutse amavuta ku mutwe; ariko uwu ansize amavuta amota cane ku birenge.

[47]Iki ni co gitumye ndakubwira yuko ahariwe vya vyaha vyiwe vyinshi; kuko yagize urukundo rwinshi; ariko uhariwe bike agira urukundo ruke.

[48]Abwira wa mugore ati: "Urahariwe ivyaha vyawe.”

[49]Maze abasangira na we batangura kwibaza bati: "Uwo ni nde, ko aharira n'ivyaha?”

[50]Abwira wa mugore ati: "Ukwizera kwawe kuragukijije, genda amahoro."

## Luka 8

[1]Hashize igihe gitoya, agendagenda mu bisagara no mu mihana, ababwira ijambo ry'Imana, avuga ubutumwa bwiza bw'ubwami bwayo; bamwe icumi na babiri bajana na we,

[2]n'abagore bamwe bakijijwe ibisigo n'indwara, Mariya ari we Magadalene, abadayimoni indwi bari baramuvuyemwo,

[3]na Yowana muka Kuza, umukuru w'abakozi bo mu rugo wa Herode, na Susana, n'abandi bagore benshi, bafashisha Yesu n'abigishwa biwe ivyabo.

[4]Ishengero ryinshi rirakorana, kandi abavuye mu bisagara vyose baza kuri we, abacira umugani

[5]ati: " "Umubivyi yasohoye imbuto ziwe; akibiba, zimwe zigwa i ruhande y'inzira, barazikandagira, inyoni zo mu kirere zirazinobagura.”

[6]Izindi zigwa ku rutare, zihejeje kumera ziruma, kuko zibuze ahabomvye.

[7]Izindi zigwa mu mahwa hagati, amahwa amerana na zo, arazinyoha.

[8]Izindi zigwa mw'ivu ryiza, ziramera, zama impeke, imwe ijana, iyindi ijana, bityobityo." Avuze ivyo, avuga n'ijwi rirenga ati: "Uwuri n'amatwi yumva ni yumve.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

9 Maze abigishwa biwe bamubaza uwo mugani, ico usobanura.

10 Arababwira ati: ""Mwebwe mwahawe kumenya amabanga y'ubwami bw' Imana; ariko abasigaye babibarirwa mu migani; ngo barabe, yamara ntibavyitegereze; bumve, yamara ntibabitahure.”

11 Umugani ni uwu. Imbuto ni ijambo ry'Imana.

12 Abo i ruhande y'inzira n'abaryumvise, maze Umwansi yaza, agakura iryo jambo mu mitima yabo, kugira ngo ntibizere ngo bakizwe.

13 Abo ku rutare ni aba: iyo bumvise iryo jambo, baryakirana umunezero, ariko ntibagira imizi, bizera akanya gato, maze mu gihe c'igeragezwa bakarireka. “

14 Izaguye mu mahwa ni abaryumvise, maze bariko barigira umwitwaririko wo muri ubu bugingo, bo n'ubutunzi n'ibihimbaro vyo muri bwo, bikabanyoha, ntibame imbuto nziza.

15 Izo mw'ivu ryiza ni abumvise iryo jambo bakarigumya mu mitima myiza itunganye, bakamishwa imbuto n'ukwihangana.

16 Kandi nta wodomeka itara, ngo aryubikeko ikintu, canke ngo arishire mu rutara, ariko arishira ku gitereko caryo, ngo abinjira basange habona.

17 Kuko ata canyegejwe kitazozanwa ahabona, canke icagizwe ibanga kitazomenyekana kikaja ahabona.

18 Mwiyubare uburyo mwumva; kuko uwufise azohabwa kandi uwudafise azokwakwa n'ico yiyumvira ko afise.

19 Maze nyina n'abavukanyi biwe baza aho ari, ntibashobora kumushikira ku bwo ishengero.

20 Baramubwira bati: "Umuvyeyi wawe na barumuna bawe bahagaze hanze bagomba kubonana nawe.”

21 Na we arabishura ati: "Mama na bene mama ni aba bumva ijambo ry'Imana bakarikora.”

22 Igihe kimwe Yesu n'abigishwa biwe batambukira mu bwato, arababwira ati: "Tujabuke, tuje hakurya y'ikiyaga." Baherako baragenda, bava ku nkombe.

23 Bariko baragenda, arasinzira; haduka igihuhusi c'umuyaga mu kiyaga, ubwato bwariko buruzura amazi, bari mw'irinde.

24 Baraza, baramukangura bati: "Mwigisha, Mwigisha, turapfuye!" Arikangura, azibiza ingunza n'ugusuriranya kw'amazi; birahora, haba agahwekere.

25 Arababaza ati: "Mbega ukwizera kwanyu kuri hehe?" Baratinya baratangara, barabazanya bati: "Mbega uwu n'umuntu ki, ko abarira n'umuyaga n'amazi bikamwumvira?”

26 Bafata hakurya mu gihugu c'Abageraseni, kirabana n'i Galilaya.

© 2007 Bible Society of Burundi.

27Ashitse i musozi, umuntu yavuye mu gisagara, yinjiwemwo n'abadayimoni, aramusanganira. Yari amaze imisi myinshi ata mpuzu acambara; nta nzu yabamwo, yaba mu masenga y'imva.

28Abonye Yesu arasemerera, amwikubita imbere, avuga n'ijwi rirenga ati: "Unshakako iki ga Yesu, Mwana w'Imana Isumbavyose?" Ndakwinginze, ntunyice rubi.

29Kuko yari abariye iyo mpwemu ihumanye kuva muri uwo muntu Yahora imutera kenshi, kandi bamubohesha iminyororo ku maboko no ku maguru, bakamurinda, agacagagura ibimuboshe, dayimoni akamutwara nk'agashururu mu bugaragwa.

30Yesu aramubaza ati: "Witwa nde?" Aramwishura ati: "Ndi Gitero." Kuko abadayimoni benshi bari baramwinjiyemwo.

31Ziramwinginga ngo ntazibarire kuja i kuzimu.

32Kandi hari ubusho bw'ingurube nyinshi zirisha kuri uwo musozi; ziramwinginga ngo azemerere kuzinjiramwo; arazemerera.

33Abadayimoni basokoroka muri uno muntu, binjira muri nya ngurube, umukuku wirukira ku gatembwe, zisuka mu kiyaga, amazi araziniga. “

34Abaziragira babibonye barahunga, babivuga mu gisagara no mu misozi.

35Na bo bavayo, baza kuraba ivyabaye, bashika aho Yesu ari, basanga wa muntu dayimoni zamuvuyemwo, yicaye i ruhande y'ibirenge vya Yesu, yambaye, ubwenge bwagarutse; baratinya.

36Ababibonye babiganira ingene uwari yinjiwemwo n'abadayimoni yakize.

37Abantu bose bo mu gihugu c'Abageraseni gikikije aho baramwinginga ngo ave i wabo, kuko bari batewe n'ubwoba bwinshi. Atambukira mu bwato, asubira inyuma.

38Ariko wa muntu dayimoni zavuyemwo aramwinginga ngo agumane na we. ariko aramusezera

39ati: " "Subira i muhira i wawe, ubadondere ivyo Imana igukoreye vyose." " Aragenda, akwiza mu gisagara cose ivyo Yesu yamukoreye vyose.

40Yesu agarutse, ishengero riramusanganira, kuko bose bari bamurorereye.

41Maze haza umuntu yitwa Yayiro, umukuru w'isengero ry'Abayuda: yitembagaza imbere y'ibirenge vya Yesu, aramwinginga ngo aze i muhira i we,

42kuko yarafise umukobwa w'ikinege, yari amaze imyaka nka icumi n'ibiri avutse, kandi yariko arahwera. Ariko aragenda, ishengero riramubanda.

43Umugore arwaye ubutinyanka, yari abimaranye imyaka icumi n'ibiri, yamariye utwiwe twose ku bavuzi adutangamwo ingemu, ntihagira uwushobora kumukiza,

44amuturuka inyuma, akora ku buyonga bw'impuzu yiwe, ako kanya umugende w'amaraso urakama.

© 2007 Bible Society of Burundi.

45Yesu arabaza ati: " "Ni nde ankozeko?" Bose bahakanye, Petero n'abari kumwe na we baramwishura bati: "Erega Mwigisha, n'ishengero rigutaye hagati rikugundanirako."

46Yesu aramubwira ati: "Hari uwunkozeko, kuko numvise ubushobozi bumvuyemwo."

47Wa mugore abonye yuko atayoberanye, aza ahinda agashitsi, amwikubita imbere, amubwirira mu maso y'abantu bose icatumye amukorako, n'uko akize uwo mwanya.

48Aramubwira ati: "Mwana wanje, ukwizera kwawe kuragukijije, genda amahoro."

49Akivuga, haza umuntu avuye kwa wa mukuru w'isengero ry'Abayuda ati: "Wa mwana wawe aracikanye, ureke kugora umwigisha."

50Maze Yesu avyumvise aramubwira ati: "Ntutinye, wizere gusa, arakira."

51Ashitse ku nzu, ntiyagira uwundi muntu akundira kwinjirana na we, atari Petero, Yohana na Yakobo, na se wa nya mukobwa na nyina.

52Asanga bamuririra bose, bishishitira. Arababarira ati: "Nta co murira, ntahwereye, ariko arasinziriye."

53Baramutwenga bamushimanga, kuko bari bazi ko yapfuye.

54Amufata ukuboko, avuga n'ijwi rirenga ati: "Mukobwa, vyuka. "

55Ubuzima bwiwe buragaruka, aca ava hasi uwo mwanya; Yesu ababarira ngo bamugaburire.

56Abavyeyi biwe baratangara, ariko arabihanikiriza ngo ntihagire umuntu n'umwe babwira ibibaye.

## Luka 9

1Akoranya bamwe icumi na babiri, abaha ubushobozi n'ububasha bwo kwirukana dayimoni bwose no gukiza indwara.

2Abatuma kubarira abantu ivyo ubwami bw' Imana, no gukiza abarwaye.

3Arababarira ati: "Ntimugire ico mujana ku nzira, ari inkoni canke isaho, canke induhuro, canke amahera; kandi ntimutware imyambaro ibiri."

4Kandi inzu yose muzokwinjiramwo, mube ari yo mugumamwo, kugeza aho muzovira aho hantu.

5Aho bazokwanka kubakira bose, mukiva muri ico gisagara, muzokunkumure umukungugu wo mu birenge vyanyu, kibe ikimenyetso kibabere icabona. "

6Baragenda, bagendagenda mu mihana, bavuga ubutumwa bwiza, bakiriza abarwaye hose.

© 2007 Bible Society of Burundi.

7Maze umwami Herode, yumvise ivyabaye vyose, arazazanirwa, kuko bamwe bavuga bati: " "Yohana yazutse mu bapfuye;"

8abandi bati: "Ni Eliya yiseruye;" abandi bati: "Ni umwe mu bavugishwa n'Imana ba kera yazutse."

9Herode aravuga ati: "Yohana ni jewe namwiciriye izosi; mbega uwo ni nde, numvako ibimeze bityo?" " Arondera uko yomubona.

10Za ntumwa zigarutse zidondera Yesu ivyo zakoze vyose. Arabajana, abihererana mu gisagara citwa Betsayida.

11Maze ishengero ribimenye riramukurikira. Arabakira, ababwira ivyo ubwami bw'Imana, kandi abagomba kuvurwa arabakiza.

12Maze buhaye burira, bamwe icumi na babiri baramwegera bati: " "Sezera abantu, baje mu mihana no mu misozi impande zose bake indaro, baronke ivyo kurya, kuko hano turi mu gahinga."

13Arababarira ati: "Ni mube ari mwebwe mubagaburira." Baramubwira bati: "Nta kindi dufise, atari udutsima dutanu n'udufi tubiri, kiretse tugiye gusumira aba bantu bose."

14Kuko bari abagabo nk'ibihumbi bitanu. Abarira abigishwa biwe ati: "Ni mubicarike bari mu mirwi y'abantu nka mirongo itanitanu." "

15Babigira batyo, barabicarika bose.

16Yakira ya mitsima itanu na za fi zibiri, ararangamiza, araba mw'ijuru, arabihezagira, arabimanyagura, abiha abigishwa ngo babishire imbere y' abantu.

17Bararya, barahaga bose, batororokanya utumanyagu tw'imisigazwa, twuzura ibiseke icumi na bibiri.

18Maze yariko arasenga yiherereye, abigishwa biwe bari kumwe na we; arababaza ati: " "Abantu bagira ngo ndi nde?"

19Baramwishura bati: "Bagira ngo uri Yohana Umubatizi; abandi ngo uri Eliya;" " abandi ngo uri umwe mu bavugishwa n'Imana ba kera yazutse."

20Arababaza ati: "Ariko mweho mugira ngo ndi nde?" Petero aramwishura ati: "Uri Kristo w'Imana."

21Arabihanikiriza, ababarira kutagira umuntu babwira ivyo

22ati: "Umwana w'umuntu akwiye kuzobabazwa uburyo bwinshi, no kuzokwankwa n'abashingantahe n'abakuru b' baherezi n'abahinga b'ivyanditswe, no kuzokwicwa, no kuzozurwa ku musi ugira gatatu."

23Abwira bose ati: "Umuntu ni yagomba kunkurikira, ni yiyanke, yikorere umusaraba wiwe uko bukeye, ankurikire."

© 2007 Bible Society of Burundi.

24Kuko ugomba gukiza ubugingo bwiwe azobubura; ariko uwuzoheba ubugingo bwiwe ku bwanje azobukiza.

25Kandi umuntu vyomumarira iki gutunga ivyo mw'isi vyose ni yiyica canke akiyaka ubugingo ubwiwe?

26Kuko umuntu wese bizotera isoni kunyemera no kwemera amajambo yanje, n'Umwana w'umuntu bizomutera isoni kumwemera, aho azozira afise ubwiza bwiwe n'ubwa Se n'ubwo abamarayika bera.

27Ariko ndababwire ukuri: muri aba bahagaze hano, harimwo bamwe batazobona urupfu gushitsa aho bazobonera ubwami bw'Imana.

28Hanyuma y'ayo majambo, hashize imisi nk' umunani, ajana Petero, Yohana na Yakobo aduga igisozi, aja gusenga.

29Ariko arasenga, ishusho yo mu maso hiwe ihinduka ukundi, imyambaro yiwe yera derere, irakayangana.

30Abagabo babiri bavugana na we, bari Mose na Eliya.

31Baboneka bafise ubwiza, bavuga ivyo kurangiza kwiwe, yagira aheraheze i Yerusalemu.

32Petero n'abari kumwe na we bari baremerewe n'itiro, bikanguye rwose babona ubwiza bwiwe na ba bagabo babiri bahagararanye na we.

33Bagira batandukane na we, Petero abwira Yesu ati: "Mwigisha, bitubereye vyiza ko turi hano; nuko twubake amahema atatu, rimwe ribe iryoiwawe, irindi rya Mose, irindi rya Eliya." Ntiyari azi ico avuga.

34Akibivuga, igicu c'igipfungu kiraza, kirabatwikira; ico gipfungu kikibashikako, baratinya.

35Ijwi riva muri nya gicu riti: "Nguwu Umwana wanje natoranije, ni mumwumve." “

36Iryo jwi rishize, Yesu aboneka ari umwe. Barabihora, ntihagira umuntu muri iyo misi babwira na kimwe mu vyo babonye.

37Bukeye bw'aho bamanutse ico gisozi, ishengero ryinshi riramusanganira.

38Kandi umugabo wo muri bo avuga n'ijwi rirenga ati: " "Mwigisha ndakwinginze, ndabira umwana, kuko namuvyaye ari ikinege,

39kandi hari impwemu imufata, agatura akaborogo, ikamujegeza, akabimba ifuro, kandi ihejeje kumukungagura ikagora cane kumuvamwo.”

40Nanje ninginze abigishwa bawe kuyisenda, irabananira.

41Yesu arishura ati: "Yemwe abo iki gihe mutizera b'ibigaba, nzogeza ryari kubana namwe no kubihanganira?" Zana hano umwana wawe.

© 2007 Bible Society of Burundi.

42ariko araza, dayimoni imutura hasi, iramujegeza cane; Yesu akankamira iyo mpwemu ihumanye, akiza uwo muhungu, amusubiza se.

43Bose batangazwa n'icubahiro gihambaye c'Imana. Ariko bose bagitangarira ivyo yakoze vyose, abarira abigishwa biwe

44ati: "Mushire aya majambo mu matwi yanyu. Umwana w'umuntu azoshirwa mu maboko y'abantu. “

45Bayoberwa iryo jambo, kandi bararihishwa ngo ntibarimenye, batinya kurimubaza iryo ari ryo.”

46Kandi havyuka ibihari muri bo, vy'umukuru wabo uwo ari we.

47Ariko Yesu abonye ivyo bihari vyo mu mitima yabo, yakira akana, agahagarika i ruhande yiwe,

48arababwira ati: " "Uwuzokwakira aka kana mw'izina ryanje, azoba anyakiriye; kandi uwunyakiriye aba yakiriye uwantumye. Kuko umuto muri mwebwe hanyuma ya mwese ari we mukuru.”

49Yohana aramwishura ati: "Mwigisha, twabonye umuntu yirukana abadayimoni mw'izina ryawe, turamubuza, kuko atadukurikira.”

50Yesu aramubwira ati: "Ntimumubuze, kuko uwutari umwansi wanyu ari mu ruhande rwanyu.”

51Maze imisi yiwe yo kuduzwa mw'ijuru igira ishike, yerekeza i Yerusalemu amaramaje kujayo,

52atuma integuza imbere yiwe. Ziragenda, zija mu mihana y'Abasamariya kumuteguriza.

53Ntibamwakira, kuko yerekeje i Yerusalemu.

54Abigishwa biwe Yakobo na Yohana, babibonye, baramubaza bati: "Mugenzi, ugomba ko tubarira umuriro ngo utibuke uve mw'ijuru, ubayigize, nk'uko Eliya yakoze?”

55Maze arahindukira arabakankamira ati: "Erega ntimuzi umutima wanyu uko usa; kuko Umwana w'umuntu ataje guhonya ubugingo bw' abantu, ariko yaje kubukiza.”

56Nuko baja mu yindi mihana.

57Bariko baragenda mu nzira, umuntu aramubwira ati: "Ndagukurikira aho uja hose.”

58Yesu aramubwira ati: "Imbwebwe ziri n'imyobo, n'ibiguruka mu kirere biri n'ivyari; ariko Umwana w'umuntu we ntagira aho arambika umusaya.”

59Maze abarira uwundi muntu ati: "Nkurikira." Na we ati: "Mugenzi, banza undekure ngende mpambe data.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

60Ariko Yesu aramubarira ati: "Reka abapfuye bahambe abapfuye babo, ariko weho genda, wamamaze ivyo ubwami bw'Imana.”

61Uwundi muntu aramubwira ati: "Mugenzi, ndagukurikira, ariko banza undekure, nje gusezera abo mu rugo i wanje.”

62Ariko Yesu aramubwira ati: "Nta muntu afashe isuka irimishwa n'inka, araba inyuma, abereye ubwami bw'Imana."

## Luka 10

1Mu nyuma y'ivyo, Umwami Yesu atoranya abandi mirongo irindwi, atuma babiribabiri, ngo babe baragenda mu gisagara vyose n'ahantu hose aho yagira ace.

2Arababwira ati: "Ivyimburwa ni vyinshi, ariko abimbuzi ni bo bake. Nuko ni mwinginge nyene ivyimburwa, arungike abimbuzi mu vyimburwa vyiwe.”

3Ni mugende; raba ndabatumye muri nk'abana b'intama mu mabingira hagati.

4Ntimujane umupfuko w'amahera, canke isaho, canke ibirato; kandi ntihagire n'uwo muramukanya mu nzira.

5Inzu yose muzokwinjiramwo, muzobanze muvuge muti: "Amahoro abe muri iyi nzu.”

6Ni yaba irimwo umunyamahoro, amahoro yanyu azoba kuri we. Ni bitamera bityo, azobagarukako.

7Kandi iyo nzu nyene muzoyigumemwo, murya munywa ivyo babahaye; kuko umukozi akwiye ingero yiwe. Ntimugende murararaguza.

8Kandi igisagara cose mujamwo bakabakira, muzorye ivyo babahaye,

9mukize abarwaye baho, mubabwire muti: 'Ubwami bw'Imana burabegereye.’

10Ariko igisagara cose mujamwo ntibababakire, muzosohoke muje mu nzira zaco

11muti: 'Ni umukungugu wo mu gisagara canyu, ufashe mu birenge vyacu, turawubakunkumuriye. Ariko mumenye iki, yuko ubwami bw'Imana buri hafi.’

12Ndababwire, Kuri wa musi w'imanza, Sodomu hazogira agahengekezo kurusha nya gisagara.

13Uzobona ibara, Korazini; uzobona ibara, Betsayida; kuko ibikomeye vyakorewe muri mwebwe iyo biba vyarakorewe muri Tiro n'i Sidoni, baba barihanye kera, bicaye bambaye amagunira, bisize umunyota.

14Ariko muri Tiro n'i Sidoni hazogira agahengekezo ku musi w'imanza kurusha mwebwe.

15Nawe, Kaperinawumu, mbega uzoshirwa hejuru, ushike kw'ijuru? Oya, uzocokezwa i kuzimu.

© 2007 Bible Society of Burundi.

16 Uwubumviye ni jewe aba yumviye; uwubanse, ni jewe aba yanse; uwunyanse, aba yanse uwantumye.

17 Nuko bamwe mirongo irindwi bagarukana umunezero bati: "Mugenzi, abadayimoni na bo baratwumvira mw'izina ryawe.”

18 Arababwira ati: "Nabonye Satani, avuye mw'ijuru, akoroka nk'umuravyo.”

19 Ehe ndabahaye ububasha bwo gukandagira inzoka na sikorupiyo, n'ubwo kunesha ubushobozi bwa wa Mwansi bwose, kandi nta kintu kizogira ico kibagira na gatoya.

20 Ariko ntimunezererezwe n'uko izo mpwemu zibumvira, yamara munezererezwe n'uko amazina yanyu yanditswe mw'ijuru.

21 Uwo mwanya anezererwa cane muri Mpwemu Yera, aravuga ati: "Ndaguhimbaza Data, Mwami w'ijuru n'isi, kuko ivyo wabihishije abanyabwenge n'abahanga, ukabihishurira inzoya. Ego me Data, kuko washimye ko biba bityo imbere yawe.

22 Vyose nabihawe na Data; kandi nta wuzi Umwana uwo ari we, atari Data; na Data nta wumuzi uwo ari we atari Umwana, n'uwo Umwana agomba kumuhishurira.”

23 Ahindukirira abigishwa, ababwira biherereye ati: "Harahiriwe amaso abona ivyo mubona.

24 Ndababwira yuko abavugishwa n'Imana benshi n'abami benshi bagomvye kubona ivyo mubona ntibababibona, no kwumva ivyo mwumva, ntibavyumva.”

25 Maze umwe mu bigisha ivyagezwe ava hasi, aramugeza ati: "Mwigisha, nkore iki, ngo nzoragwe ubugingo budashira?”

26 Na we aramubaza ati: "Vyanditswe bite mu vyagezwe, kandi usoma iki?”

27 Aramwishura ati: "Mukundishe Uhoraho, Imana yanyu, imitima yanyu yose, n'ubugingo bwanyu bwose, n'inkomezi zanyu zose, n'ubwenge bwanyu bwose; kandi mukunde ababanyi banyu nk'uko mwikunda.”

28 Aramubwira ati: "Wishuye neza, gira utyo, uzogira ubugingo.”

29 Maze uwo agomvye kwiyerekana nk'uwugororotse, abaza Yesu ati: "Mbega umubanyi wanje ni nde?”

30 Yesu aramwishura ati: "Habaye umuntu yari avuye i Yerusalemu, ariko aramanuka aja i Yeriko, agwa mu bambuzi, baramukoba, baramukubita, barigira. Basiga asigaje gatoya agahwera.”

31 Hariho n'umuherezi amanuka muri iyo nzira, amurengukako, amubonye aca i ruhande.

32 Kandi n'Umulewi ahashitse agira kuno, amubonye aca i ruhande.

33 Maze Umusamariya yari mu nzira ashika kuri we, amubonye amutera akagongwe.

© 2007 Bible Society of Burundi.

34Aramwegera, amupfuka inguma, amutimburisha amavuta ya elayo n'umuvinyu, amushira ku ndogoba yiwe, amujana mu ndaro y'abahita, aramurwaza.

35Bukeye asokorora idenariyo zibiri, aziha nyene indaro ati: "Umurwaze, kandi ivyo uzotanga vyose birenze ivyo ni nagaruka nzobikwishura.”

36Muri abo batatu ugira ngo ni nde yabonetse ko ari umubanyi w'uwaguye mu bambuzi?

37Aramwishura ati: "Ni uwamugiriye imbabazi." Yesu aramubarira ati: "Nawe genda ugire utyo.”

38Maze bariko baragenda bashika mu mihana. Umugore yitwa Marita aramwakira amushikiza mu nzu yiwe.

39Uwo mugore yari afise mwene nyina yitwa Mariya, yicara imbere y'ibirenge vy'Umwami Yesu, yumva ijambo ryiwe.

40Ariko Marita ahagarikira umutima kuzimana vyinshi; aramwegera, aramubwira ati: "Mugenzi, ntibikubabaje yuko mwene mama yantereranye ibikorwa?" Nuko mubarire amfashe.

41Umwami Yesu aramwishura ati: "Marita, Marita, uriganyira wigora muri vyinshi.

42Ariko igikwiye rwose ni kimwe; erega Mariya ahisemwo umugabane mwiza atazokwakwa."

## Luka 11

1Umusi umwe Yesu yari ahantu ariko arasenga. Ahejeje, umwe mu bigishwa biwe aramubwira ati: "Mugenzi, twigishe gusenga, nk'uko Yohana yigishije abigishwa biwe.”

2Arababarira ati: "Ni mwasenga, muvuge muti: 'Data, izina ryawe ni ryubahwe, ubwami bwawe ni buze;

3imisi yose uduhe ivyo kurya bidukwiye.

4Uduharire ivyaha vyacu, kuko natwe duhebera abari n'imyenda yacu bose; kandi ntutujane mu bitwosha nabi.”

5Arababwira ati: "Ni nde muri mwebwe afise umugenzi yoja i we mu gicugu, akamubwira ati: "Mugenzi wanje, ngurana udutsima dutatu,

6kuko haje umugenzi wanje avuye ku rugendo, nanje ntagira ico ndamuzimana.”

7Uwo mu nzu yomwishura ati: "Sigaho kungora, namaze kwugara, kandi turi kumwe n'abana banje ku buriri, sinshoboye kuvyuka ngo ndayiguhe.”

8Ndababwire, Naho atovyurwa n'uko ari umugenzi wiwe ngo ayimuhe, ariko kuko atagize isoni zo kumugobera, aravyuka, akamuha ivyo agomba vyose.

© 2007 Bible Society of Burundi.

9Nanje ndababwire; Musabe muzohabwa; murondere muzoronka; muramutse muzokwugururirwa.

10Kuko uwusaba wese ahabwa; uwurondera aronka; uwuramutsa yugururirwa.

11Canke muri mwebwe hari umuvyeyi umwana wiwe yomusaba umutsima, akamuha ibuye; canke yomusaba ifi, akamuha inzoka;

12canke yomusaba irigi, akamuha sikorupiyo?

13None mwebwe, ko muzi guha abana banyu ingabire nziza muri babi, mbega So wo mw'ijuru ntazorushiriza rwose guha Mpwemu Yera abamumusavye?

14Kandi yirukana mu muntu dayimoni itera uburagi. Iyo dayimoni imuvuyemwo, uno muntu w'ikiragi aravuga; ishengero riratangara.

15Ariko bamwe muri bo baravuga bati: "Beyezebuli, umukuru w'abadayimoni, ni we amushoboza kwirukana abadayimoni.”

16Abandi bamuronderako ikimenyetso kiva mw'ijuru, bamugeza.

17Na we amenye ivyo biyumvira, arababwira ati: "Ubwami bwose iyo bwitandukanije ubwabwo burahona, n'inzu, iyo yitandukanije, iragwa.”

18Na Satani, namba yitandukanije ubwiwe, ubwami bwiwe buzorama bute? Kuko muvuga yuko Beyezebuli ari we anshoboza kwirukana abadayimoni.

19Ariko jewe namba Beyezebuli ari we anshoboza kwirukana abadayimoni, abana banyu bashobozwa na nde kubasenda? Ni co gituma ari bo bazobatsindisha.

20Ariko urutoke rw'Imana ni rwaba ari rwo runshoboza kwirukana abadayimoni, noneho ubwami bw'Imana burabashikiriye. “

21Umuntu w'inkomezi afise ibirwanisho iyo ateramiye urugo rwiwe, ibintu vyiwe biba amahoro;

22ariko uwumurusha inkomezi iyo aramutse amuteye, akamunesha, amwaka ivyo arwanisha vyose yari yizigiye, akanyaga ibintu vyiwe, akabigaba.

23Uwutampererereyeko aba ari umwansi wanje, kandi uwudafatanije nanje kwegeranya aba asanzaje.

24Iyo impwemu ihumanye ivuye mu muntu, ica ahatagira amazi, irondera uburuhukiro, ikabubura, ikavuga iti: "Reka nsubire mu nzu yanje navuyemwo.”

25Ihashitse, igasanga ikubuye, iteguritse.

26Igaca igenda, ikazana izindi mpwemu indwi ziyirusha ububi, zikinjira, zikahaba. Ivya nyuma vy'uwo muntu bikarusha ivya mbere ububi. “

27Yesu akivugana n'Ishengero umugore umwe ashira ijwi hejuru aramubwira ati: "Irahiriwe inda yakuvyaye, n'amabere yakwonkeje.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

28Na we aramwishura ati: "Canecane hahiriwe abumva ijambo ry'Imana bakaribungabunga."

29Ishengero rimaze kugwirirana atangura kubabwira ati: "Abo iki gihe ni abantu babi; barondera ikimenyetso, ariko nta kimenyetso bazohabwa, atari ikimenyetso ca Yona."

30Nk'uko Yona yabaye ikimenyetso ku Banyaninewe, ni ko Umwana w'umuntu azoba ku b'iki gihe.

31Umwamikazi w'igihugu c'i Sheba. Azovana hasi n'abagabo b'iki gihe ku musi w'imanza, azobatsindisha; kuko yavanywe ku mpera y'isi no kwumva ubwenge bwa Salomo; kandi raba, uwuruta Salomo ari hano.

32Abagabo b'i Ninewe bazovana hasi n'abo iki gihe ku musi w'imanza, babatsindishe; kuko bihanye aho bumviye ubutumwa buvuzwe na Yona; kandi raba, uwuruta Yona ari hano.

33Nta wodomeka itara ngo arishire mu mwobo, canke ngo aryubikeko igiseke, ariko arishira ku gitereko caryo, ngo abinjira basange habona.

34Itara ry'umubiri wawe n'ijisho ryawe. Ijisho ryawe iyo ari ryiza, umubiri wawe wose uba uri n'umuco; ariko iyo rirwaye, umubiri wawe uba uri n'umwiza.

35Nuko rero ugabe umuco uri muri wewe ntube umwiza.

36Kandi umubiri wawe wose ni waba uri n'umuco, ata gice na kimwe gifise umwiza, wose uzoba uri n'umuco, nk'uko ukwaka kw'itara kukuboneshereza.

37Akibivuga, Umufarisayo aramuhamagara ngo amuzimane. Arinjira, aricara ngo arye.

38Wa Mufarisayo abonye atabanje gukaraba atararya biramutangaza.

39Umwami Yesu aramubwira ati: "Erega mwebwe Abafarisayo mwoza inyuma y'igikombe n'inkoko, ariko imbere muri mwebwe mwuzuye ubwambuzi n'ububi."

40Mwa bijuju mwe, iyaremye urukoba si yo yaremye n'imbere?

41Ariko Muzotange ibiri imbere mu gikombe no mu nkoko mubitangishijwe n'ubuntu, kandi umve, vyose bizobabera ibiziruwe.

42Ariko muzobona ibara, Bafarisayo, kuko mutanga icacumi c'imbwija, ico isogi n'ico imboga zose, ariko ubutungane n'ugukunda Imana mukavyirengagiza. Ivyo mwari mukwiye kubikora, vya bindi na vyo ntimubireke.

43Muzobona ibara, Bafarisayo, kuko mukunda intebe z'icubahiro mu nsengero, no kugirwako bwakeye mu kibanza c'amakoraniro.

44Muzobona ibara, kuko musa n'imva zitamenyekana, abantu bakazicako batabizi.

45Umwe mu bigisha ivyagezwe aramwishura ati: "Mwigisha, ko uvuze utyo, natwe uradututse."

© 2007 Bible Society of Burundi.

46Na we ati: "Namwe abigisha ivyagezwe muzobona ibara, kuko mwikoreza abantu imitwaro itokwikorerwa, namwe ubwanyu iyo mitwaro ntimuyikozeko urutoke na rumwe.”

47Muzobona ibara, kuko mwubakira imva z'abavugishwa n'Imana, ba sogokuruza banyu ari bo babishe.

48Uko ni ko mwiyagirije, kandi mwemeye ivyo ba sogokuruza banyu bakoze, kuko ari bo babishe, namwe mububakira imva.

49Ni co catumye Imana ivugisha ubwenge bwayo iti: "Nzobatumako abo mvugisha n'intumwa, bamwe muri bo bazobica, abandi bazobahama,

50ngo amaraso y'abavugishwa n' Imana bose yavishijwe, uhereye ku kuremwa kw'isi, aronderwe ku b'iki gihe,

51uhereye ku maraso ya Abeli, ukageza ku maraso ya Zakariya yiciwe hagati y'igicaniro n'ahera h'urusengero: ni koko, ndababwire, azoronderwa ku b'iki gihe.”

52Muzobona ibara, abigisha ivyagezwe, kuko mwatwaye urupfunguruzo rw'ubwenge; ntimwinjiye ubwanyu, n'abagomba kwinjira mwarababujije.

53Maze asohotse, abahinga b'ivyanditswe n'Abafarisayo batangura kumusugereza no kumwiyandagazako ngo bamuvugishe vyinshi,

54bamutega ngo bafate ijambo bokwumva avuga ngo bamurege.

## Luka 12

1Muri ico gihe, ishengero ry'abantu ibihumbi vyinshi rikoranira kuri we, bakandagirana, ahera ku bigishwa biwe, arababarira ati: ""Mwirinde umwambiro w'Abafarisayo, ni wo buryarya.”

2Nta catwikiriwe kitazotwikururwa, canke icanyegejwe kitazomenyekana.

3Nuko ivyo mwavugiye mu mwiza vyose bizokwumvikanira mu muco, n'ico mwongoreraniye mu mazu haruguru kizovugirwa ku mazu hejuru.

4Kandi ndabwira mwebwe abakunzi banje; Ntimugatinye abica umubiri, hanyuma batagira ikindi bazobagira.

5Ariko ndabereka iyo mukwiye gutinya; mutinye Iyiheza kwica umuntu, ikagira ububasha bwo kumukororera muri Gehinomu. Ni koko, ndababwire, ni mube ari yo mutinya.

6Mbega utunyoni dutanu ntitugurwa amakuta abiri? Ariko kamwe muri two ntikibagirwa imbere y'Imana.

7Ariko n'umushatsi wo ku mitwe yanyu wose waraharuwe. Ntimutinye; muruta utunyoni twinshi. “

© 2007 Bible Society of Burundi.

8 Kandi ndababwire; Umuntu wese azonyaturira imbere y'abantu, Umwana w'umuntu azomwaturira imbere y'abamarayika b'Imana.

9 Ariko uwunyihakanira imbere y'abantu, azokwihakanirwa imbere y'abamarayika b'Imana.

10 Kandi umuntu wese azodedemba ku Mwana w'umuntu, azobiharirwa; ariko uwuzodedemba kuri Mpwemu Yera ntazobiharirwa.

11 Kandi ni babajana mu nsengero z'Abayuda bakabashira abakuru n'abaganza, ntimuzohagarikishwe imitima n'ico muzokwireguza n'ingene muzokwiregura canke n'ico muvuga.

12 Kuko muri ako kanya nyene, Mpwemu Yera ababwiriza ivyo mukwiye kuvuga.

13 Maze umuntu wo mw'ishengero ryari rikoraniye aho aramubwira ati: "Mwigisha, mbaririra mwene mama tugabure umwandu.”

14 Aramubaza ati: "Mbega wa mugabo, ni nde yanshizeho kuba umucamanza wanyu, canke kubagaburira ivyanyu?”

15 Kandi arababarira ati: "Murumva, mwirinde ukwifuza kwose, kuko ubugingo bw'umuntu butava mu bihinda vy'ibintu atunze.”

16 Kandi abacira umugani ati: "Habaye umuntu w'umutunzi yarafise itongo rimera cane.”

17 Yiyumvira mu mutima wiwe ati: "Ndagira nte, ko ntagira aho nimburira imirima yanje?”

18 Ati: "Ndabigenza gutya: ndasambura ibigega vyanje, nubake ibindi bininibinini, abe ari ho nimburira imirima yanje yose n'ibintu vyanje vyose.”

19 Mpeze mbwire umutima wanje nti: "Mutima, ufise ibintu vyinshi bizohitira imyaka myinshi, ruhuka, urye, unywe, unezerwe.”

20 Maze Imana iramubwira iti: "Wa gipfu we muri iri joro barakwaka ubugingo bwawe; none ivyo woziganije bizoba ivya nde?”

21 Umuntu yishingurira ni ko amera, atari umutunzi mu vy'Imana.

22 Abwira abigishwa biwe ati: "Ni co gitumye ndababarira nti: 'Ntimukaganyire amagara yanyu ku vyo muzorya, canke umubiri wanyu ku vyo muzokwambara.’

23 Kuko amagara aruta ivyo kurya, n'umubiri uruta imyambaro.

24 Ni mwitegereze ibikona, ingene bitabiba, ntibishwabure, ntibigire ububiko canke ikigega, kandi Imana irabitunga. Erega mwebwe muruta ibisiga cane.

25 Ni nde muri mwebwe ku bwo amaganya yiwe yoshobora kwiyongerako n'akangana n'ukuboko kumwe?

26 Nuko ko mudashobora gukora gito rwose ni iki gituma mwiganyira ibindi?

© 2007 Bible Society of Burundi.

27Ni mwitegereze amashurwe, ingene akura; ntiyirirwa araruha, ntajisha impuzu; ariko ndababwire na Salomo mu bwiza bwiwe bwose ntiyari ashajije nka rimwe muri ayo.

28None Imana ko yambika ivyatsi vyo ku misozi ityo, biriho uwu musi, ariko nk'ejo bigatererwa mu ziko, mbega ntizorushiriza kubambika, mwebwe abo ukwizera guke mwe?

29Kandi ntimukitwaririke ivyo murya n'ivyo munywa, ntimukiganyire.

30Kuko ivyo vyose abanyamahanga bo mw'isi ari vyo bitwaririka, ariko So arazi ko mubikena ivyo.

31Ariko mwitwaririke ubwami bwiwe, ni ho ivyo muzovyongerwa.

32Yemwe mwa busho buto, ntimutinye; kuko So bimuhimbara kubaha ubwami.

33Mugurishe ivyo mufise, Muzotange ibiguzi vyavyo ku bwo ubuntu; mwibaririre imipfuko idashira, ubutunzi budashira buri mw'ijuru, ahategerwa n'igisuma, ata n'inyenzi zonona;

34kuko aho ubutunzi bwanyu buri ari ho imitima yanyu izoba.

35Mwame mukenyeye, kandi amatara yanyu yame yaka.

36Ni mube nk'abantu barorereye shebuja, igihe agarukira ava mu bukwe, ngo ni yaza, akaramutsa, bace bamwugururira.

37Harahiriwe abo bashumba, abo shebuja azoza agasanga bari maso. Ndababwire ukuri; azokenyera, abicarike, aze, abagaburire.

38Ni yaza mu gicugu canke mu nkoko, akabasanga atyo, bazoba abahirwe.

39Kandi mumenye iki, yuko iyaba nyene urugo yari asanzwe azi igihe igisuma kiziramwo, yogavye, ntiyokunze ko inzu yiwe yimbwa.

40Namwe mwame mwiteguye, kuko Umwana w'umuntu azoza mu gihe mutiyumviriye.

41Petero aramubaza ati: "Mbega Mugenzi, uwo mugani ni twebwe twenyene uwuciriye, canke uwuciriye n'abandi bose?"

42Umwami Yesu na we aramubaza ati: "Ni nde munyabigega wo kwizigirwa w'ubwenge, shebuja yosigarana abo mu rugo rwiwe, ngo abagaburire ku ngero yabo igihe kigeze?"

43Harahiriwe uwo mushumba shebuja agarutse azosanga akora atyo.

44Ndababwira ukuri yuko azomuha kugaba ivyo afise vyose.

45Ariko uwo mushumba ni yibwira mu mutima wiwe ati: "Databuja aracatevye kuza; maze agatangura gukubita abashumba n'incoreke, akaja mu vyo kwirira no kwinywera akaborerwa,

© 2007 Bible Society of Burundi.

46shebuja w'uwo mushumba azoza ku musi atamwiteze, no mu gihe atazi, azomuhana vy'akarorero, amusangize umugabane wiwe n'abatizera.

47Kandi uwo mushumba yari azi ivyo shebuja agomba, ntiyitegure, ntakore ivyo agomba, azokubitwa nyinshi.

48Ariko uwutari abizi, agakora ibikwiye kumukubitisha, azokubitwa nkeya. Uwahawe vyinshi wese azobazwa vyinshi; uwabikijwe vyinshi ni we bazorushiriza kwaka vyinshi.

49Naje guta umuriro mw'isi, none iyaba wari umaze gufatwa, nta kindi mba nkigomba?

50Hariho umubatizo nkwiye kubatizwa. Umubabaro mfise mu mutima ntuzohera ntarawubatizwa.

51Mbega mwiyumvira ko naje kuzana amahoro mw'isi?

52Ndababwire, si ko biri, ariko naje kubaryanisha. Kuko uhereye ubu, ahazoba batanu mu nzu imwe bazokwicamwo ibice, batatu barwanye babiri na babiri barwanye batatu.

53Umwana azotandukana na se, na se n'umwana ni uko; umukobwa azotandukana na nyina, na nyina n'umukobwa ni uko; inabukwe azotandukana n'umukazana wiwe, n'umukazana na inabukwe ni uko.

54Kandi abwira ishengero ati: "Iyo mubonye igicu kivuye mu burengero, muca mugira ngo imvura iraguye; kandi ni ko biba.”

55Iyo mubonye umuyaga uturutse mu bumanuko mugira ngo Haraba indugumba, kandi ni ko biba.

56Mwa ndyarya mwe, murazi kugenzura isi n'ijuru, ni iki kibabuza kugendeza iki gihe?

57Kandi namwe ubwanyu ni iki kibabuza kugenzura ivyo kugororoka?

58Ni wajana n'uwukurega muja ku mushingantahe, mukiri mu nzira ushishikare kuringaniza na we, ngo ntagukwegere ku mucamanza, umucamanza akaguha umusoda, akagushira mw'ibohero.

59Ndakubwire, Ntuzohava na gatoya, utishuye n'ihera rya nyuma.

## Luka 13

1Ico gihe abantu bari aho bamwiganira ivyo Abanyagalilaya Pilato yishe akavanga amaraso yabo n'ayo ibitungwa bariko barashikana.

2Arababaza ati: "Mbega mwiyumvira yuko abo Banyagalilaya barusha abandi Banyagalilaya kuba abanyavyaha, kuko bagizwe batyo?”

3Ndababwire, si ko biri; ariko ni mutihana, namwe muzohona mutyo mwese.

© 2007 Bible Society of Burundi.

4Canke ba bandi icumi n'umunani, bamwe umunara muremure w'amatafari w'i Silowamu wahomvokeyeko, ukabica, mwiyumvira yuko barusha abandi b'i Yerusalemu bose kuba abanyabicumuro?

5Oya na mba! Si ko biri. Na mwebwe ni mutihana muzohona mutyo mwese.

6Kandi abacira uwu mugani ati: "Habaye umuntu yari afise igiti c'umusukoni catewe mu murima wiwe w'umuzabibu akironderako ivyamwa arabibura."

7Abwira umukozi w'uwo murima w'inzabibu ati: "Raba, ubu haheze imyaka itatu nza kurondera ivyamwa ku giti c'umusukoni, sindabibone; ni uwuce, kigasarira iki aha hantu?"

8Na we aramwishura ati: "Ehe databuja, kireke uwu mwaka na wo, ndacorohereze, ndagitabirire.

9Hanyuma ni cama insukoni bizoba ari vyiza; ariko ni yo kitama, uzogica.

10Ku musi w'isabato Yesu yariko yigishiriza mu rusengero rumwe rw'Abayuda.

11Hari umugore yinjiwemwo n'impwemu itera ubumuga, yari amaze imyaka icumi n'umunani ahetamye, adashobora kwunamuka na gatoya.

12Yesu amubonye aramuhamagara, aramubwira ati: "Nyina wanje, urabohowe ubumuga bwawe."

13Amurambikako ibiganza, uwo mwanya aragororoka, ahimbaza Imana.

14Ariko umukuru w'isengero ry'Abayuda yitonganiriza ivyo uko Yesu akijije umuntu kw'isabato, abwira abantu ati: "Hariho imisi itandatu, ikwiye gukorwako ibikorwa; mube ari yo muzako mukizwe, ariko atari ku musi w'isabato.

15Umwami Yesu aramwishura ati: "Mwa ndyarya mwe, mbega umuntu wese muri mwebwe ntazitura inka yiwe canke indogoba yiwe mu ruhongore kw'isabato, akayijana, akayishora ku mugezi?"

16None uwu ko ari umukobwa wa Aburahamu, yaboshwe na Satani iyo myaka icumi n'umunani yose, ntakwiye kubohorwa iyo ngoyi ku musi w'isabato?

17Akivuga ivyo, abamurwanya bose baramaramara, ishengero ryose rinezererwa ivyiza vy'agahebuza yakora vyose.

18Kandi aravuga ati: "Ubwami bw'Imana busa n'iki, kandi ndabushushanye ni igiki?"

19Busa n'akabuto k'umukaratusi, umuntu yakiriye, akagatera mu ntabire yiwe, kagakura, kakaba igiti, inyoni zo mu kirere zikarika mu mashami yaryo.

20Yongera kuvuga ati: "Ubwami bw'Imana ndabushushanye ni igiki?"

21Busa n'umwambiro umugore yakiriye akawuvanga n'ingero zitatu z'ifu, gushitsa aho bikakamye yose.

© 2007 Bible Society of Burundi.

22Ari mu nzira, ahita mu bisagara no mu mihana, yigisha, ari ku rugendo aja i Yerusalemu.

23Umuntu aramubaza ati: "Mugenzi, mbega abakizwa ni bake?" Na we arababarira

24ati: "Mushishikare guca mw'irembo ripfunganye. Ndababwira yuko benshi bazogomba kuricamwo, ntibabishobore."

25Nyene inzu ni yaheza guhaguruka, akugara urugi, mugatangura gukomanga muhagaze hanze, mukavuga ko umupfasoni abugururira. Ni ho azovuga ko atabazi, atazi n'iyo muvuye.

26Ni ho muzotangura kuvuga ko mwarira, mwanywera imbere yiwe kandi yigishiriza mu nzira z'i wanyu.

27Azobabwira ati: "Ndababwire, sinzi iyo muvuye; mviraho, mwebwe mwese mwabakora ibizira mwe."

28Aho ni ho hazoba amarira no kuryanya insya z'amenyo, aho muzobonera Aburahamu, Isaka, Yakobo n'abavugishwa n'Imana bose bari mu bwami bw'Imana, namwe muhindiwe hanze.

29Hazoza abava mu buseruko, mu burengero, mu buraruko no mu bumanuko, bazokwicara mu bwami bw'Imana.

30Kandi hari abo inyuma bazoba abo imbere, n'abo imbere bazoba abo inyuma.

31Uwo mwanya haza Abafarisayo bamwe, baramubarira bati: "Ni uve hano ugende, kuko Herode agomba kukwica."

32Arababarira ati: "Ni mugende mubwire iyo mbwebwe ko nirukana abadayimoni, nkiza abantu uwu musi n'ejo, ku musi ugira gatatu nzotunganywa rwose."

33Ariko nkwiye kugenda uwu musi n'ejo na hirya y'ejo, kuko bidashoboka ko uwuvugishwa n'Imana yicwa, atari i Yerusalemu.

34Ewe Yerusalemu, ewe Yerusalemu, wica abavugishwa n'Imana, ugatera amabuye abagutumweko! Ni kangahe nagomvye gukorany'abana bawe, nk'uko inkoko ikoranya imiswi yayo iyibundikira mu vyubi vyayo, ntimwakunda.

35Raba, inzu yanyu murayitanywe izocika umusaka. Kandi ndababwire, Ntimukimbona kugeza aho muzovugira muti: 'Hashemezwe uwuje mw'izina ry'Uhoraho.'"

## Luka 14

1Yinjiye mu nzu y'umwe mu bakuru b'Abafarisayo kw'isabato kurya, baramugenza.

2Imbere yiwe hari umuntu arwaye urusina.

3Yesu abaza abigisha ivyagezwe n'Abafarisayo ati: "Mbega biremerwa gukiza umuntu kw'isabato, canke ntivyemerwa?"

© 2007 Bible Society of Burundi.

4Maze barihorera. Aramufata, aramukiza, aramusezera.

5Kandi arababaza ati: "Ni nde muri mwebwe afise umwana canke inka, hogira igikorokera mw'iriba, ntiyoca agikurayo kw'isabato?"

6Ntibashobora kumwishura muri ivyo.

7Kandi acira umugani abatumiwe, abonye ingene batanguranwa ivyicaro vy'icubahiro;

8arababwira ati: "Umuntu ni yagutorera ubukwe, ntuzokwicare mu cicaro c'abakuru; ngo kumbure ntihabeho umuntu akurusha icubahiro yatowe,

9kandi uwabatoye mwempi akaza akakubwira ati: "Ni ubise uwu ahicare. Ni ho uzomaramara, ukagenda, ukicara inyuma y'abandi bose.

10Ariko ni watumirwa, ugende, wicare inyuma y'abandi bose, kugira ngo uwagutoye aje, akubwire ati: "Igira ino haruguru mugenzi; ni ho uzobona icubahiro imbere y'abo mwicaranye musangira bose."

11Kuko umuntu wese yishira hejuru azocishwa bugufi, kandi uwicisha bugufi azoshirwa hejuru.

12Kandi abwira uwamutumiye ati: "Ni wategura inzimano ku murango canke mw'ijoro, ntuzotumire abagenzi bawe canke abo muvukana canke incuti zawe canke ababanyi bawe b'abatunzi; kuko kumbure na bo bogutumira, bakagusubiriza.

13Ariko ni wategura inzimano, upfume utumira aboro, ibirema, abacumbagira n'impumyi: ni ho uzoba uhiriwe;

14kuko badafise ivyo kukwishura, ariko uzokwishurwa mw'izuka ry'abagororotsi.

15Maze umwe mu bicaranye na we avyumvise, aramubwira ati: "Harahiriwe uwuzorira mu bwami bw'Imana."

16Na we aramubwira ati: "Habaye umuntu yarondeje amazimano menshi, atumira benshi.

17Igihe co kurya gishitse, atuma umushumba wiwe kubarira abatowe, ngo baze, kuko bihejeje gutegurwa."

18Bose bahuriza hamwe umutima wo kwidohora, baramwisaba. Uwa mbere ati: "Naguze itongo, nkwiye kuja kuriraba; ndakwinginze, uramvugira antunge."

19Uwundi ati: "Naguze inka icumi, ngiye kuzirimisha ngo ndabe; ndakwinginze, uramvugira antunge."

20Uwundi ati: "Narongoye, ni co kimbujije kuza."

21Maze wa mushumba agarutse, abwira shebuja uko vyagenze. Nyene urugo araraka, abarira umushumba wiwe ati: "Genda ningoga, uje mu nzira zagutse no mu nzira ntonto zo mu gisagara, uzane hano aboro n'ibirema n'impumyi n'abacumbagira."

© 2007 Bible Society of Burundi.

22Umushumba wiwe ati: "Mugenzi, ico umbariye ndagikoze, ariko imyanya iracasigaye."

23Shebuja abarira uno mushumba wiwe ati: "Genda uje mu nzira zagutse no mu mihora, ubagobere baze, kugira ngo inzu yanje yuzure."

24Ndababwira yuko ata muntu n'umwe wo muri abo natumiye aza kugira ico atamira mu vyo nabateguriye.

25Kandi ishengero ryinshi ryari rijanye na we. Arahindukira, arababwira

26ati: "Umuntu ni yazako, ntiyanke se, nyina, umugore wiwe, abana biwe, abavukanyi biwe, bashiki biwe, mbere n'amagara yiwe na yo, ntashobora kuba umwigishwa wanje."

27Uwutikorera umusaraba wiwe ngo ankurikire, ntashobora kuba umwigishwa wanje.

28Ni nde muri mwebwe agomba kwubaka umunara w'amatafari muremure, ntiyobanza kwicara, akarimbura igitigiri c'amahera yowubaka, ngo amenye yuko afise ayowuheraheza?

29Ngo kumbure yoba ahejeje kwubaka amatafari y'intango, ntashobore kuwuzuza; ababibonye bose bagatangura kumutwenga

30bavuga ko uwu yatanguye kwubaka, ntashobora kwuzuza. "

31Canke hari umwami yoba agiye guhura n'uwundi ngo barwane, ntiyobanza kwicara, akaja inama, ko yoshobora kujana ingabo ibihumbi icumi guhwana ni uwumuteye ari n'ingabo ibihumbi mirongo ibiri?

32Bisanzwe atari ko biri, wa wundi akiri kure cane, amutumako intumwa, akamubaza indishi yomuha ngo babane amahoro.

33Ni ko biri, umuntu wese muri mwebwe adaheba ivyo afise vyose ntashobora kuba umwigishwa wanje.

34Umunyu ni mwiza; ariko umunyu wo, woshira uburyohe, woba ukiryoshwa ni igiki?

35Nta co umaze mu murima canke mw'icukiro; bapfa kuwuta. Uwuri n'amatwi yumva ni yumve. "

## Luka 15

1Abatozakori bose n'abanyavyaha bariko baramwegera, ngo bamwumve.

2Abafarisayo n'abahinga b'ivyanditswe baridodomba bati: "Uwo yiyegereza abanyavyaha, agasangira na bo."

3Abacira uwu mugani

4ati: "Hogira umuntu muri mwebwe afise intama ijana, yozimiza imwe muri zo, ntiyosiga izindi mirongo icenda n'icenda mu gahinga, akaja kurondera iyazimiye, kugeza aho ayibonera?"

© 2007 Bible Society of Burundi.

5Iyo ayibonye, ayiterera ku bitugu anezerewe;

6yashika mu rugo, agahamagara incuti ziwe n'ababanyi biwe, akababwira ati: "Tunezeranwe, kuko ndabonye intama yanje yari yazimiye.”

7Ndababwira yuko mw'ijuru bazonezererwa batyo umunyavyaha umwe yihanye, bakamurutisha abagororotsi mirongo icenda n'icenda batarinda kwihana.

8Canke umugore yogira amahera icumi, akabura rimwe, ntiyodomeka itara, agakubura inzu, akarondera ashishikaye kugeza aho aribonera?

9Iyo aribonye, ahamagara incuti ziwe n'ababanyi biwe, akababwira ko anezewe, kuko abonye ihera yari yazimije.

10Ndababwire, Uko ni ko haba umunezero imbere y'abamarayika b'Imana ku bwo umunyavyaha umwe yihanye.

11Kandi arababwira ati: "Habaye umuntu yari afise abahungu babiri.”

12Umuhererezi abwira se ati: "Data ni umpe umugabane w'ibintu notwaye." Abagaburira itunga ryiwe.

13Imisi mike ishize, umuhererezi akoranya ibintu vyiwe vyose, aragenda, aja mu kindi gihugu ca kure; ashitseyo asesagurira ibintu vyiwe mu buhumbu.

14Abimaze vyose, ikigoyi gikomeye gitera muri ico gihugu, atangura gufutana.

15Aragenda, ashumba ku muntu wo muri ico gihugu, amurungika ku gasozi kiwe kuragira ingurube.

16Yifuza guhazwa n'ibishishwa ingurube zarya, ntihagira uwubimunutsa.

17Yisubiyemwo, aribwira ati: "Abacangero ba data bangana kuriya, kandi bahazwa n'ivyo kurya bakabisigaza, nayo jeho inzara iriko iranyicira hano.”

18Reka mve hasi, nje kwa data, ndamubwire nti: "Data, nacumuye ku Yo mw'ijuru no mu maso yawe,

19singikwiye kwitwa umwana wawe. Pfuma ungira umucangero wawe.”

20Ava hasi, aja kwa se. Se amubona akiri kure, amutera akagongwe, arirukanga, amugwa mu nda, aramugumbira.

21Wa muhungu aramubwira ati: "Data, nacumuye ku Yo mw'ijuru no mu maso yawe, singikwiye kwitwa umwana wawe.”

22Maze se abarira abashumba biwe ati: "Ni muzane ningoga ikanzu iruta izindi, muyimwambike, mumwambike n'impeta ku rutoke n'ibirato mu birenge.

23Muzane ya nka ivyibushe inuze, muyibage, turye tunezerwe.

24Kuko uwu mwana wanje yari yarapfuye, none arazutse; yari yarazimiye none arabonetse." Nuko batangura kunezerwa.

© 2007 Bible Society of Burundi.

25Ariko umwana wiwe w'imfura yari mu murima; ariko araza, agira ashike ku nzu, yumva inanga n'intambo.

26Ahamagara umwe mu bashumba, amubaza ibibaye ivyo ari vyo.

27Aramwishura ati: "Murumunawe yaje, so yamubagiye ya nka ivyibushe inuze, kuko amubonye agikomeye."

28Araraka, yanka kwinjira. Se arasohoka, aramwinginga.

29Maze abwira se ati: "Raba iyi myaka ingana itya ndagukorera, nta ho nigeze kwanka ico wangezeko, nanje nta ho wigeze kumpa n'agasuguru, ngo nezeranwe n'abagenzi."

30Maze uwo mwana wawe aje, yamaze ivyawe abisambanisha, umubagira ishuri inuze.

31Na we aramubwira ati: "Mwana wanje, tubana imisi yose, kandi ivyanje vyose ni ivyawe.

32Ariko akanyamuneza no guhimbarwa biratubereye. Kuko uwu murumunawe yari yapfuye, none arazutse; yari yarazimiye none arabonetse."

## Luka 16

1Maze abwira abigishwa biwe ati: "Habaye umuntu w'umutunzi yari afise umukuru w'abakozi bo mu rugo rwiwe, bamumuregako ko asesagura ibintu vyiwe."

2Aramuhamagaza, aramubaza ati: "Ivyo ndakwumvako ni ibiki?" Harura igitigiri c'ivyo wabikijwe, kuko utagikwiye kuba umukuru w'abakozi bo mu rugo rwanje.

3Uwo mukuru w'abakozi bo mu rugo aribaza ati: "Mbe ndabigire gute, ko databuja agira ansohore mu bubwiriza bwanje?" Sinshobora kurima, binteye isoni ko nosegerereza.

4Ndazi ico nkora, ngo ni nasohorwa mu bubwiriza bazontunge mbe mu ngo zabo.

5Ahamagara abari n'imyenda ya shebuja bose umwumwe, abaza uwa mbere ati: "Harya databuja umufitiye ibingana iki?"

6Aramwishura ati: "Ingero ijana z'amavuta ya elayo." Na we ati: "Akira ikete ryawe, wicare ningoga, wandike mirongo itanu."

7Kandi abaza uwundi ati: "Harya weho umufitiye ibingana iki?" Aramwishura ati: "Ingero ijana z'ingano." Aramubarira ati: "Akira ikete ryawe, wandike mirongo umunani."

8Nuko shebuja ashima uwo munyabigega agabitanya, kuko yakoze ivyo ubwenge; kuko abana b'iki gihe bagira ubwenge mu vy'ubu bugingo kurusha abana b'umuco.

9Nanje ndababwire, Itunga ribi muryironkeshereze incuti, ngo ni ryabura bazobatunge mube muri za ngo zitazoshira.

© 2007 Bible Society of Burundi.

10Uwukora ivyo yizigiweko ku coroshe cane, agira atyo no ku gikomeye. Uwugabitanya ku coroshe cane, agabitanya no ku gikomeye.

11Namba mutabaye abizigirwa kw'itunga ribi mubikijwe, ni nde azobabitsa itunga nyaryo?

12Kandi namba mudakora ivyo mwizigiweko ku vy' abandi mwabikijwe, ni nde azobaha ivyo mwokwiganzira?

13Nta muntu asaba abami babiri; yokwanka umwe, agakunda uwundi, canke yoguma kuri umwe, akagaya wa wundi. Ntimushobora gusaba Imana n'Itunga.

14Abafarisayo, bari abantu bakunda itunga, bumvise ivyo vyose, baramutwenga cane.

15Arababwira ati: "Mwebwe mugomba kwiyerekana nk'abagororotse mu maso y'abantu, ariko Imana irazi imitima yanyu; kuko igishizwe hejuru mu bantu ari igisesema mu maso y'Imana.”

16Ivyagezwe, bo n'amajambo y'abavugishwa n'Imana, vyabayeho gushitsa igihe ca Yohana. Uhereye ico gihe ubutumwa bwiza bw'ubwami bw'Imana ni ho bwavugiwe, umuntu wese akabutanguranirwa.

17Icoroshe ni uko ijuru n'isi vyovaho, hako akazatsa na kamwe kova ku rudome rumwe rwo mu vyagezwe.

18Umuntu wese yirukana umugore wiwe, akarongora uwundi, aba asambanye; kandi n'uwurongora umugore yahukanye n'umugabo wiwe aba asambanye.

19Habaye umuntu w'umutunzi yambara impuzu zitukura z'igiciro kinini n'izera nziza, yama adibamye mu vyiza imisi yose.

20Kandi hariho n'umworo yitwa Lazaro, yatembagara kw'irembo ryiwe yatonyanga ibisebe.

21Yifuza guhazwa n'udukorokera musi y'imeza y'uno mutunzi; kandi imbwa na zo zaraza zikamurigata ibisebe.

22Hanyuma rero wa mworo arapfa, abamarayika bamujana mu gikiriza ca Aburahamu. Na nya mutunzi arapfa, arahambwa.

23Ari i kuzimu, ararangamiza, ababazwa cane, abona Aburahamu ari kure, na Lazaro ari mu gikiriza ciwe.

24Aratabaza ati: "Aburahamu muvyeyi, ngirira ikigongwe, rungika Lazaro, akoze isonga y'urutoke mu mazi, ampfuvye ururimi, kuko nseserejwe muri uru rubeya.”

25Aburahamu aramubwira ati: "Mwana wanje, ibuka yuko wahawe ivyiza vyawe ukiriho, Lazaro na we yahawe ibibi. None amariwe imibabaro hano, nawe uraseserezwa.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

26Mbere ukuye n'ivyo, hagati yacu namwe hariho imanga ihambaye yashizweho kugira ngo ni hagira abagomba kuva ino bakaja aho muri ntibabishobore, kandi ngo ntibave iyo ngo bashike aho turi.

27Na we ati: "Ndakwingize se muvyeyi, umurungike mu rugo kwa data,

28kuko mfise bene mama batanu; ababwire uko bimeze, ngo na bo ntibazoze hano hantu ho kubabarizwa."

29Aburahamu aramubwira ati: "Bafise ivya Mose n'ivyo abavugishwa n'Imana, ni babumvire."

30Na we ati: "Oyaye, Aburahamu muvyeyi, ariko ni hajayo uwuvuye mu bapfuye, bazokwihana."

31Aramubwira ati: "Ni batumvira Mose n'abavugishwa n'Imana, ntibokwemera naho umuntu yozuka mu bapfuye."

## Luka 17

1Kandi abwira abigishwa biwe ati: "Ibitsitaza abantu ntibizobura kuza, ariko uwubizana azobona ibara."

2Ivyoba vyiza ni uko yohambirirwa urusyo ruremereye kw'izosi, agatererwa mu kiyaga, hako atsitaza n'umwe muri aba bato.

3Mwirinde; mugenzawe musangiye ukwizera ni yakora icaha, umuhanure; ni yihana, umuharire.

4Kandi ni yakugirira nabi indwi ku musi umwe, agahindukira incuro indwi, akubwira ko yihanye uzobimuharire.

5Kandi za ntumwa zibwira Umwami Yesu ziti: "Ni utwongere ukwizera."

6Umwami arabishura ati: "Namba mufise ukwizera kungana n'akabuto k'umukaratusi, mwobarira iki giti c'umusukamino muti: 'Randuka, ubadikwe mu kiyaga,' kandi cobumvira.

7Ariko ni nde muri mwebwe afise umushumba amurimira canke amuragirira intama, iyo yinjiye avuye ku kivi canke kuragira, mbega yomubarira ko aza ningoga akicara akarya?

8Ariko ntiyomubarira ko yarura ivyo kurya vyiwe, agakenyera akamugaburira, gushika aho ahejeje kurya no kunywa na we hanyuma abone kurya no kunywa?

9Mbega akengurukira uwo mugurano kuko yakoze ivyo yamugezeko?

10Mube ari ko namwe mugira, ni mwaheza gukora ivyo mwagezweko vyose, muvuge ko muri abaja gusa, mwakoze ivyo mwategerezwa gukora vyonyene.

11Maze bari mu nzira baja Yerusalemu, aca hagati y'i Samariya n'i Galilaya.

12Ashitse mu mihana, asanganirwa n'abanyamibembe icumi, bahagarara kure,

© 2007 Bible Society of Burundi.

13baratabaza cane bati: "Yesu, Mwigisha, tugirire imbabazi."

14Ababonye arababwira ati: "Ni mugende, mwiyereke abaherezi." Bariko baragenda
barakira, barahumanuka.

15Umwe muri bo, abonye akize, agaruka ahimbaza Imana n'ijwi rirenga.

16Yikubita imbere y'ibirenge vyiwe, aramushima; kandi uwo yari Umusamariya.

17Yesu arabaza ati: "Ntibahumanutse bose uko ari icumi?" Abandi icenda bari hehe?

18Nta bandi babonetse ngo bagaruke guhimbaza Imana, atari uwu munyamahanga?

19Kandi aramubarira ati: "Va hasi, ugende; ukwizera kwawe kuragukijije."

20Abafarisayo bamubajije igihe ubwami bw'Imana buzozira, arabishura ati: "Ubwami
bw'Imana ntibuzoza bwerekanwa,

21kandi ntibazovuga bati: 'Ehe ngubu; canke nguburiya; kuko ubwami bw'Imana buri
muri mwebwe."

22Abwira abigishwa biwe ati: "Hazoza imisi muzokwifurizamwo kubona umusi umwe
musa w' Umwana w'umuntu, ntimuzowubona."

23Kandi bazobabwira ngo nguriya; canke ngo nguwu. Ntimuzojeyo, kandi
ntimubakurikire.

24Kuko nk'uko umuravyo urabiriza mu ruhande rumwe rw'ijuru, ukarabagiranira mu
rundi, uko ni ko Umwana w'umuntu azoba ku musi wiwe.

25Ariko akwiye kuzobanza kubabazwa uburyo bwinshi no kwankwa n'abo iki gihe.

26Kandi uko vyari biri mu misi ya Nowa, ni ko bizoba mu misi y'Umwana w'umuntu:

27bararya, baranywa, bararongora, barashingira, bageza kuri wa musi Nowa yinjiye
muri bwa bwato, umwuzure ukaza ukabahonya bose.

28No mu misi ya Loti vyabaye bityo: bararya, baranywa, baradandaza, baragura,
baratera, barubaka.

29Maze umusi Loti yaviriye i Sodomu, umuriro n'ibizuku biratibuka bivuye mw'ijuru,
birabahonya bose.

30Ni ko bizoba, umusi Umwana w'umuntu azoserukirako.

31Uwo musi, uzoba ari hejuru ku nzu, ibintu vyiwe biri mu nzu, ntazokwururutswe no
kubisahura, n'uwuri mu mirima ni uko, ntazosubire inyuma.

32Mwibuke muka Loti.

33Uwuzogerageza gukiza ubugingo bwiwe azobubura; ariko uwuzoheba ubugingo
bwiwe azoburokora.

34Ndababwire, muri iryo joro abantu babiri bazoba ku buriri bumwe, umwe azojanwa,
uwundi arekwe;

© 2007 Bible Society of Burundi.

35aho abagore babiri bazoba bariko barasera hamwe, umwe azojanwa, uwundi arekwe;

[ 36aho babiri bazoba mu mirima, umwe azojanwa, uwundi arekwe. ] 37Baramubaza
bati: "Bizoba hehe ga Mushingantahe?" Arabishura ati: " aho umuvyimba uri hose, ni
ho ibikona bizokoranira."

## Luka 18

1Abacira umugani wo kubigisha ko bakwiye guhora basenga, ntibarambirwe.

2Arababwira ati: "Mu gisagara habaye umucamanza, adatinya Imana, ntagire udusoni ku bantu.”

3Muri ico gisagara hari umupfakazi, aza kuri we kenshi, aramusaba ko amucira urubanza rumukiza umwansi wiwe.

4Amara imisi atemera, ariko hanyuma aribwira ati: "Naho ntatinya Imana, kandi singire isoni z'abantu,

5ariko kuko uwo mupfakazi angoye, ndamucira urubanza rumukiza, ngo ntiyame aza imisi yose, akanzigiriza.”

6Kandi Umwami Yesu aravuga ati: "Ni mwumve ivyo uwo mucamanza agabitanya yavuze.”

7None mbega Imana ntizocira urubanza rukiza abo yatoranije, bayiborogera ku murango no mw'ijoro, naho ibatevya?

8Ndababwira yuko izorubacira vuba. Ariko Umwana w'umuntu ni yaza, mbega azosanga ukwizera mw'isi?

9Uwu mugani na wo awucira abiyizigira ubwabo ko bagororotse, bagakengera abandi bose

10Ati: "Abantu babiri baduze baja mu rusengero gusenga, umwe yari Umufarisayo, uwundi yari umutozakori.”

11Umufarisayo ahagaze asengera ku mutima wiwe ati: "Mana, ndagushimye yuko ntameze nk'abandi bose, abasahura, abagabitanya, abasambanyi canke n'abameze nk'urya mutozakori.”

12Mu misi indwi yose nisonzesha kabiri, ntanga icacumi c'ivyo ndonka vyose.

13Ariko wa mutozakori, ahagaze kure, ntiyagomba no kurangamiza ngo arabe mw'ijuru, ariko arishishitira ati: "Mana, ngirira ikigongwe, ndi umunyavyaha.”

14Ndababwire, Uwo muntu yamanutse aja i we, atsindanishirijwe kuruta wa wundi; kuko uwishira hejuru wese azocishwa bugufi, ariko uwicisha bugufi azoshirwa hejuru.

15Maze bamuzanira abana babo b'inzoya ngo abakoreko. Abigishwa babibonye barabakankamira.

© 2007 Bible Society of Burundi.

16Maze Yesu arabahamagara ati: "Ni mureke abana bato baze aho ndi, ntimubabuze; kuko ubwami bw'Imana ari ubwo abameze batyo.”

17Ndababwire ukuri; Uwutazokwakira ubwami bw'Imana nk'umwana muto ntazobwinjiramwo na gatoya.

18Umukuru w'isengero ry'Abayuda aramubaza ati: "Mwigisha mwiza, nkore iki, ngo nzoragwe ubugingo budashira?”

19Yesu aramubaza ati: "Unyitira iki mwiza?" Nta mwiza atari umwe, ni we Mana.

20Urazi ivyagezwe, ngo Ntugasambane, ntukice, ntukibe, ntukagirize abandi ibinyoma, wubahe so na nyoko.

21Aramubwira ati: "Ivyo vyose naravyitondeye, mpereye mu buto bwanje.”

22Yesu avyumvise aramubwira ati: "N'ubu uracahajije kimwe; shora ivyo ufise vyose, ugabire aboro, ni ho uzogira itunga mw'ijuru, uteko uze, unkurikire.”

23Maze yumvise ivyo, arababara cane, kuko yari atunze vyinshi.

24Yesu amwitegereje aravuga ati: "Erega biragoye ko aba vyinshi binjira mu bwami bw'Imana !”

25Kuko icoroshe ari uko ingamiya yoca mw'izuru ry'urushinge hako umutunzi yinjira mu bwami bw'Imana.

26Abavyumvise baravuga bati: "Ubu rero, ni nde ashobora gukizwa?”

27Maze arababwira ati: "Ibidashobokera abantu bishobokera Imana.”

28Petero aravuga ati: "Raba, twebwe twaretse ivyacu, turagukurikira.”

29Arababwira ati: "Ndababwire ukuri, Nta waretse inzu, canke umugore, canke abavukanyi biwe, canke abavyeyi, canke abana, ku bwo ubwami bw'Imana,

30atazobishumbushwa umurengera muri iki gihe, no mu gihe kizoza atazohabwa ubugingo budashira.”

31Yihereranya bamwe icumi na babiri, arababwira ati: "Ehe turaduze i Yerusalemu, kandi ivyanditswe n'abavugishwa n'Imana vyose bizoshika ku Mwana w'umuntu.”

32Azoshirwa mu maboko y'abanyamahanga, acokorwe, ateterezwe, avumwe amate;

33kandi bazomushishagura, bamwice, ku musi ugira gatatu azozuka. “

34Ntibagira ico batahura muri ivyo, kandi iryo jambo bari barihishijwe, ntibamenya ivyo babwiwe.

35Ageze hafi y'i Yeriko, hari impumyi yicaye i ruhande y'inzira, isegerereza.

36Yumvise ishengero rihita, ibaza ivyo ari vyo.

37Barayibwira bati: " "Ni Yesu Umunyanazareti ahita.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

38Irasemerera iti: "Yesu, mwana wa Dawidi, ngirira imbabazi."

39Abagiye imbere barayizibiranya ngo ihore. Ariko irushiriza cane gutakamba iti: "Mwana wa Dawidi, ngirira imbabazi."

40Yesu arahagarara, avuga ko bayimuzanira; ishitse hafi, arayibaza

41ati: "Ugomba ko ndagukorera iki?" Iramwishura iti: "Ndagomba guhumuka, Mwami wanje."

42Yesu arayibwira ati: "Humuka, ukwizera kwawe kuragukijije."

43Aca ahumuka buno nyene, amukurikira ahimbaza Imana; abantu bose babibonye bashima Imana.

## Luka 19

1Ashika i Yeriko, ariko arahaca.

2Hari umuntu yitwa Zakayo, yari umutozakori mukuru, kandi yari umutunzi.

3Ageza kuraba Yesu, ngo amenye uko asa, bimwankira ku bwo ishengero, kuko yari mugufi.

4Arirukanga, aja imbere, yurira igiti citwa umusukomora ngo amurabe, kuko yagira ace muri iyo nzira.

5Yesu ahashitse, ararangamiza, aramubarira ati: "Zakayo, ururuka vuba, kuko uwu musi nkwiye kurara i wawe."

6Yururuka vuba, amwakirana akanyamuneza.

7Babibonye, bose baridodomba bati: "Ko yinjiye kurarira umuntu w'umunyavyaha!"

8Zakayo arahagarara, abwira Umwami Yesu ati: "Raba Mugenzi, umugabane w'itunga ryanje ngira ndawuhe aboro; kandi umuntu wese nagunze ndabimurihe kane."

9Yesu amuvugako ati: "Uwu musi agakiza gashitse muri iyi nzu, kuko uwu na we ari umwana wa Aburahamu."

10Kandi Umwana w'umuntu yazanywe no kurondera no gukiza icari cazimiye.

11Bakiriko barumva ivyo, avyongerako umugani, kuko yari hafi y'i Yerusalemu, kandi kuko biyumvira yuko ubwami bw'Imana bugira buboneke uwo mwanya;

12nuko aravuga ati: "Habaye umuganwa yagiye mu gihugu ca kure kwimikirwayo, ngo agaruke."

13Ahamagara icumi bo mu bishikira biwe, abaha ibingorongoro icumi vy'izahabu, arababarira ati: "Muyacuruze, gushika aho nzozira."

14Ariko abantu biwe baramwanka, bamukurikiza intumwa bati: "Uwo ntitugomba ko atuganza."

© 2007 Bible Society of Burundi.

15Agarutse, amaze kwimikwa, ahamagaza ba bishikira yasigaranye ya mahera, ngo amenye inyungu umuntu wese yungutsemwo mu kuyacuruza.

16Uwa mbere arengutse, aravuga ati: "Mugenzi, ibingorongoro cawe cungutsemwo ibindi bingorongoro vy'inzahabu icumi.”

17Aramubwira ati: "Wagize neza, muntu wanje mwiza, ko wabaye umwizigirwa no kuri gito cane, ni ube umutware w'ibisagara icumi.”

18Uwa kabiri arengutse, aravuga ati: "Mugenzi, ibingorongoro cawe cungutsemwo ibindi bingorongoro bitanu.”

19Uwo na we aramubarira ati: "Nawe twara ibisagara bitanu.”

20Uwundi arengutse, aravuga ati: "Mugenzi, ngiki kingorongoro cawe, nabitse kitekeye mu kiremo;

21kuko nagutinye ko uri umuntu w'umuhambazi, uterura ivyo utahateretse, wimbura ivyo utarimye.”

22Aramubwira ati: "Ndagucira urubanza ku vyakuvuye mu kanwa, wa muntu wanje mubi we. Ko wari uzi yuko ndi umuntu w'umuhambazi, nterura ivyo ntahateretse, nimbura ivyo ntarimye;

23none se cakubujije guha abacuruza amahera yanje, nanje nagaruka nkayakwaka n'inyungu yayo?”

24Abarira abahagazeho ati: "Ni mumwake ca kingorongoro, mugihe uwufise ibingorongoro icumi.”

25Baramubwira bati: "Mugenzi, mbega ko afise icumi !”

26Ndababwire, Uwufise wese azohabwa, ariko uwudafise azokwakwa n'ico yarafise.

27Ariko abo bansi banje batakunze ko ndabaganza ni mubazane hano, mubicire imbere yanje.

28Yesu ahejeje kuvuga ivyo, aja imbere, aduga aja i Yerusalemu.

29Ageze hafi y'i Betifage n'i Betaniya, ku musozi witwa Elayono, atuma babiri bo mu bigishwa,

30arababarira ati: "Nimuje muri iriya mihana iri imbere yanyu, ni mwayishikamwo, murabona inyana y'indogoba iziritse, ata muntu yigeze kuyigenderako; muyiziture muyizane.

31Kandi ni hagira uwubabaza igitumye muyizitura? mumwishure ko Sobuja ari we ayigomba.”

32Abatumwe baragenda, babisanga uko yabibabwiye.

33Bariko barazitura ya nyana y'indogoba, bene yo barababaza bati: "Ko muzitura iyo nyana ni ibiki?”

© 2007 Bible Society of Burundi.

34Barabishura bati: "Databuja ni we ayigomba.”

35Bayizanira Yesu, bayishirako impuzu zabo, bayiterekako Yesu.

36Ariko aragenda, basasa impuzu zabo mu nzira.

37Agira ashike, ageze ku kamanuko k'umusozi wa Elayono, ishengero ryose ry'abigishwa ritangura kunezerwa no guhimbaza Imana n'ijwi rirenga, bayishimira ibitangaza babonye vyose

38bati: "Nihashemezwe Umwami, aje mw'izina ry'Uhoraho, Amahoro abe mw'ijuru, Icubahiro ni kibe mw'ijuru ahasumba vyose.”

39Abafarisayo bamwe bo mw'ishengero baramubarira bati: "Mwigisha, zibiza abigishwa bawe.”

40Arabishura ati: "Ndababwire, Aba ni bahora, amabuye arasemerera.”

41Ashitse hafi, abona igisagara, arakiririra

42ati: "Uwu musi iyo umenya ivyo amahoro! Ariko ubu bihishijwe amaso yawe.”

43Kuko imisi izokuzako, aho abansi bawe bazokurundira ikirundo c'ivu kigukikije, na bo ubwabo bakagukikiza, bakakwugariza impande zose,

44bakagukekana n'abana bawe bo muri wewe; kandi ntibazogusigariza ibuye na rimwe rigeretse ku rindi, kuko utamenye igihe wagendewemwo.

45Yinjira mu rusengero, atangura guhindira hanze abarudandarizamwo,

46arababwira ati: "Vyanditswe, ngo ingoro yanje izoba inzu yo gusengeramwo; ariko mwebwe mwayihinduye nk'isenga ry'abambuzi.”

47Kandi yigishiriza mu rusengero imisi yose. Ariko abaherezi bakuru n'abahinga b'ivyanditswe n'abantu bakurubakuru bo muri ubwo bwoko barondera ingene bomwica,

48babura uko bamugira; kuko abantu bose bari bamurundanyeko, batamariwe.

## Luka 20

1Umusi umwe, yigishiriza abantu mu rusengero, avuga ubutumwa bwiza, abaherezi bakuru, abahinga b'ivyanditswe n'abashingantahe baza aho ari.

2Baramubaza bati: "Tubwire ububasha bugutera gukora ivyo. Canke ubwo, ni nde yabuguhaye?”

3Arabishura ati: "Nanje hinge ndababaze ijambo, mumbwire:

4none ukubatiza kwa Yohana kwaturutse mw'ijuru, canke mu bantu?

5Baravugana bati: "Ni twavuga ko ari mw'ijuru; ahava atubaza icatubujije kumwemera?

© 2007 Bible Society of Burundi.

6Ariko ni twavuga ko ari mu bantu, abantu bose baradutera amabuye, kuko bemeye badakekeranya yuko Yohana yavugishwa n'Imana.”

7Bamwishura yuko batazi aho kwavuye.

8Yesu arababwira ati: "Nuko rero nanje sindababwira ububasha bunkoresha ivyo.”

9Atangura gucira abantu uwu mugani ati: "Habaye umuntu yateye umurima w'inzabibu, arusigarana abarimyi, aja mu mahanga, amarayo igihe kirekire.

10Igihe c'iyera kigeze, atuma umukozi kuri ba barimyi, ngo bamwamurire ivyamwa vy'umurima w'inzabibu. Abo barimyi baramushishagura, bamurungika imbokoboko.

11Yongera gutuma uwundi mukozi; uwo na we baramushishagura, baramutetereza, bamurungika gusa.

12Atuma n'uwa gatatu; uwo na we baramukomeretsa, baramuhinda.”

13Nyene umurima w'inzabibu aribaza ati: "Ndabigire gute? Ndatuma umwana wanje nkunda, kumbure bazomusonera.”

14Ariko abo barimyi bamubonye baja inama bati: "Urya ni we samuragwa; ingo tumwice, kugira ngo umwandu uzobe uwacu.”

15Bamuhindira inyuma y'umurima w'imizabibu, baramwica. None nyene umurima w'inzabibu azobagira ate?

16Azoza yice rubi abo barimyi, umurima w'inzabibu arusigarane abandi. Bavyumvise baravuga bati: "Biragahera.”

17Arabitegereza, arababaza ati: "None rero aya majambo yanditswe ni amaki, ngo ibuye abubatsi bagaye, Ni ryo ryahindutse irigumya imfuruka?”

18Uwuzogwa kuri iryo buye wese azovunagurika, ariko uwo rizogwako wese rizomuvungura. “

19Abahinga b'ivyanditswe bo n'abaherezi bakuru ako kanya barondera ingene bomushorerako ako kanya amaboko, ariko batinya abantu; kuko bamenye yuko ari bo yaciyeko uwo mugani.

20Baramugenza, batuma abo kumudaha amajambo bigira intungane, ngo bakure urwitwazo mu vyo avuga, bamushire segaba nyene ububasha, ari we cegera ca Kayisari.

21Baramubaza bati: " "Mwigisha, turazi yuko uvuga kandi wigisha neza, kandi k'uwudatinya ijunja ry' abantu, ariko ko wigisha inzira y'Imana vy'ukuri;

22mbega biremerwa ko dutanga ikori rya Kayisari, canke ntivyemerwa?”

23Maze amenya uguhendana kwabo, arababwira

24ati: "Ni munyereke ihera; igishushanyo n'ivyanditswe kuri ryo ni ivya nde?" Bati: "Ni ivya Kayisari.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

25Arababarira ati: "Nuko rero ivya Kayisari ni mubihe Kayisari, ivyo Imana mubihe Imana.”

26Ntibashobora gukura urwitwazo muri ayo majambo imbere y'abantu, batangazwa n'ivyo abishuye, barahora.

27Abasadukayo bamwe baza kuri we, ni bo bahakana yuko ata kuzuka kuriho, baramubaza

28bati: "Mwigisha, Mose yatwandikiye yuko mwene nyina w'umuntu ni yapfa adasize agahungu, agasiga umugore, mwene nyina akwiye gucura uwo mugore, ngo avyure umuryango wa mwene nyina.”

29Nuko rero habaye abavukana indwi; uwa mbere arongora umugore, apfa adasize agahungu;

30uwa kabiri aramucura,

31n'uwa gatatu nyene, ni uko bose uko ari indwi baramucura, bapfa badasize impfuvyi.

32Hanyuma na wa mugore arapfa.

33None mw'izuka azoba muka nde muri bo? Ko bari bamufise bose uko ari indwi!

34Yesu arabishura ati: "Abo iyi si bararongora, kandi barashingirwa,

35ariko abemerewe gushika muri ya yindi no kuzuka mu bapfuye ntibarongora kandi ntibashingirwa;

36kandi ntibaba bagishobora gupfa, kuko baringaniye n'abamarayika, kandi ari abana b'Imana, kuko ari abana b'ukuzuka.”

37Ariko ivyo abapfuye ko bazuka, na Mose yabimenyekanishije hamwe havuga ivyo Igisaka c'amahwa, aho yita Uhoraho Imana ya Aburahamu, Imana ya Isaka n'Imana ya Yakobo.

38Erega Imana si iyo abapfuye, ariko ni iyo abariho; kuko kuri yo bose bariho.

39Bamwe mu banyabwenge b'ivyanditswe baramwishura bati: "Mwigisha, uvuze neza.”

40Ntibaba bacubahuka kumubaza irindi jambo.

41Arababaza ati: "Bavuga bate yuko Kristo ari umwana wa Dawidi?

42Ko Dawidi ubwiwe avuga mu gitabo ca Zaburi ati: 'Uhoraho yabariye Umwami wanje Ati: ' Icara i buryo bwanje,’

43Ushitse aho nzohindurira abansi bawe indava yo musi y'ibirenge vyawe.’

44Dawidi ko yamwise Umwami, none ashobora ate kuba umwana wiwe?”

45Maze abarira abigishwa biwe, abantu bose bumva

© 2007 Bible Society of Burundi.

46 ati: "Mwirinde abahinga b'ivyanditswe, bakunda kugenda bambaye imvune, bagakunda kugirwako bwakeye mu tuguriro, no kwicara ku ntebe z'icubahiro mu nsengero z'Abayuda, n'ivyicaro vyo haruguru aho batumiwe."

47 Barya ingo z'abapfakazi, kandi basengesha menshi bahumba; abo bazocirwa urubanza ruruta izindi.

## Luka 21

1 Yunamura amaso, abona abatunzi bashikana, baterera ibimazi vyabo mu masandugu y'amahera.

2 Abona umupfakazi w'umworo ateramwo amasenge abiri.

3 Arababwira ati: "Ndababwire ukuri, uwu mupfakazi w'umworo ashikanye ibirengeye ivyo abandi bose:

4 kuko abo bose batereye mu mashikanwa ku bibasagutse, ariko we ku bworo bwiwe ashikanye ibimutunze vyose."

5 Mu gihe bamwe bariko baravuga ingene urusengero rwasharijwe n'amabuye meza hamwe n'amashikanwa; Yesu arabakurira inkoni ku gishitsi

6 ati: "Ivyo vyose mubona, mu misi izoza ntihazosigara ibuye rigeretse ku rindi ridasamburiwe hasi."

7 Baramubaza bati: "Mwigisha, none ivyo bizobaho ryari?" Ikimenyetso kizoba iki c'igihe ivyo bizoba bigira bishike?

8 Arababarira ati: "Mwirinde ntimuzimizwe; kuko benshi bazoza mw'izina ryanje bati: 'Ndi we; kandi igihe kiri hafi;' ntimuzobakurikire.

9 Kandi ni mwumva intambara n'imivurungano, ntimuzocike ivutu; kuko ivyo bitazobura kubanza kubaho, ariko umuhero ntuzoca ushika."

10 Maze arababwira ati: "Ihanga rizotera irindi hanga, n'ubwami buzotera ubundi bwami.

11 Kandi isi izonyiganyiga cane henshi, kandi hamwehamwe hazotera amapfa, hatere ni ikiza, habeho n'ibiteye ubwoba n'ibimenyetso bihambaye biva mw'ijuru.

12 Ariko ivyo vyose bitarabaho bazobafata amaboko, babahame, babashengerane mu nsengero z'Abayuda, babashirishe mu mabohero, babashengeze ku bami no ku baganza, babahora izina ryanje;

13 bicike ikimenyetso kibere mwebwe icabona."

14 Nuko ibi mubishireko imitima, yuko mudakwiye kubanza kwiyumvira ivyo muzokwireguza.

15 Kuko ari jewe nzobaha ururimi n'ubwenge, ivyo ababarwanya bose batazoshobora gutsinda canke gutururuza.

© 2007 Bible Society of Burundi.

16Ariko muzoshengezwa n'abavyeyi banyu na bo, n'abavukanyi bawe n'incuti n'abakunzi, bamwe muri mwebwe bazobicisha.

17Muzoba mwanswe na bose babahora izina ryanje.

18Kandi ntihazohara agashatsi na kamwe ko mu mitwe yanyu.

19Ukwihangana kwanyu ni kwo kuzotuma mukiza ubugingo bwanyu.

20Ariko ni mwabona i Yerusalemu hakikijwe n'ibitero, muzomenye yuko hagire hasenyagurike.

21Ico gihe abazoba bari i Yudaya bazohungire ku misozi miremire, kandi abazoba bari hagati muri Yerusalemu bazohasokoroke, kandi abazoba bari mu misozi ntibazoje i Yerusalemu.

22Kuko iyo misi izoba iyo guhora, kugira ngo ivyanditswe vyose bishike.

23Muri iyo misi abazoba batwaye inda n'abonsa bazobona amahano; kuko hazoba umubabaro mwinshi mu gihugu, kandi ishavu buzoba kuri ubu bwoko.

24Bazokwicwa n'ubugi bw'inkota, bazojanwa mu mahanga yose ari imbohe. Kandi i Yerusalemu hazosiribangwa n'abanyamahanga, kugeza aho ibihe vy'abanyamahanga bizoshirira.

25Kandi hazoba ibitangaza ku zuba, ku kwezi no ku nyenyeri. Mw'isi naho hazoba umubabaro mu mahanga yose babure uko babigenza kubwo ukwasiranya kw'imipfunda y'ikiyaga.

26Kandi abantu bazogwishwa igihumura n'ubwoba no kwitega ibigira bibe mw'isi; kuko ivyo inkomezi vyo mw'ijuru bizonyiganyizwa.

27Ni ho bazobona Umwana w'umuntu aje mu gicu, afise ububasha n'ubwiza bwinshi.

28Ariko ivyo ni vyatangura kubaho, muzohagarare murangamize kuko gucungurwa kwanyu kuzoba kugira gushike.”

29Kandi abacira umugani ati: "Ni murabe umusukoni n'ibiti vyose.

30Iyo bitoshe, murabibona, mukamenya ubwanyu yuko agatasi kari hafi.

31Nuko namwe ni mwabona ivyo bibaye, muzomenye yuko ubwami bw'Imana buri hafi.

32Ndababwire ukuri, abo iki gihe ntibazorangira, ivyo vyose bitarashika.

33Ijuru n'isi bizorangira, ariko amajambo yanje nta co azoba.

34Ariko mwirinde, kugira ngo imitima yanyu ntiremerwe no kudandahirwa no kuborerwa n'umwitwaririko w'ivyo ubu bugingo, ngo uwo musi ntubazeko giturumbuka, nk'umutego;

35kuko ari ko uzoshika ku bantu bose bacumbitse mw'isi yose.

© 2007 Bible Society of Burundi.

36Mwame mugavye, musenge mu bihe vyose, kugira ngo muzoshobore guhunga ivyo vyose bigira bibeho, ngo muhagarare imbere y'Umwana w'umuntu.

37Imisi yose Yesu yirirwa mu rusengero yigisha, ariko bwira, agasohoka, akaja kurara ku musozi witwa Elayono.

38Abantu bose bakazindukira kuri we mu rusengero kumwumva.

## Luka 22

1Imisi mikuru y'ukurya imitsima itambiwe yitwa Pasika yagira ishike.

2Abaherezi bakuru n'abahinga b'ivyanditswe barondera uburyo bwo kumwica, kuko batinya abantu.

3Satani yinjira muri Yuda ari we Isikaryota, yari mu gitigiri ca bamwe icumi na babiri.

4Aragenda, aja inama n'abaherezi bakuru n'abakuru b'abacungera irembo ry'urusengero, y'uburyo bwo kumubaronkera.

5Baranezerwa, basezerana kumuha amahera y'ifeza.

6Na we aremera, arondera uburyo bwo kumubaronkera, ishengero ritariho.

7Umusi w'ukurya imitsima itambiwe urashika, uwo bakwiye kubagako umwagazi w'intama wa Pasika.

8Atuma Petero na Yohana, arababarira ati: " "Ni mugende, mudutegurire ivya Pasika, kugira ngo turye.”

9Baramubaza bati: "Ugomba ko tubitegurira hehe?”

10Arabishura ati: "Umve, mumaze gushika mu gisagara, murahura n'umugabo yikoreye umubindi w'amazi; mumukurikire mu rugo ajamwo.”

11Mubwire nyene urugo ko umwigisha abaza aho indaro iri, aho asangirira ivya Pasika n'abigishwa biwe?

12Na we arabereka icumba kinini co mw'igorofa gitunganijwe; mube ari co muteguriramwo.

13Baragenda, babisanga uko yabibabariye, bategura ivya Pasika.

14Igihe gishitse, aricara ngo arye, kandi intumwa na zo zicarana na we.

15Arababwira ati: "Nari navyipfuje cane gusangira namwe ivyo iyi Pasika, ntarababazwa.

16Ndababwire, Sinzokwongera kuyiryako, kugeza aho izoshikira mu bwami bw'Imana.”

17Yakira igikombe, agishimira Imana, arababarira ati: "Nimucakire, mugisangire;

© 2007 Bible Society of Burundi.

18kuko ndababwira yuko uhereye ubu ntazokwongera kunywa ku nzabibu, kugeza aho ubwami bw'Imana buzozira.”

19Yakira umutsima, awushimira Imana, arawumanyagura, arawubaha, arababwira ati: "Uwu ni umubiri wanje ubatangiwe; murakore mutya kugira ngo kibe icibutso canje.”

20N'igikombe akigenza atyo bahejeje kurya, arababwira ati: "Iki gikombe n'isezerano rishasha ryo mu maraso yanje, abaviriye.”

21Kandi raba, ukuboko kw'uwungura kuri kumwe nanje ku meza.

22Ni ukuri, Umwana w'umuntu aragenda, nk'uko vyashinzwe; ariko uwo muntu amugurisha azobona ibara.

23Batangura kubazanya, ngo ni nde muri bo agira akore ico kintu. Abigishwa baja Impari z'ivyo ubukuru

24Maze havyuka impari muri bo, z'uwuzoba umukuru uwo ari we.

25Arababwira ati: "Abami b'amahanga bayatwaza amanyama, n'abafise ububasha bwo kuyaganza bitwa ba rutungaboro.”

26Ariko mwebwe si uko; mugabo umukuru muri mwebwe abe nk'umuto, n'uwuganza abe nk'uwubakorera.

27Umukuru ni nde, ni uwukorerwa, canke ni uwumukorera? Mbega si uwukorerwa ariko jeho ndi hagati muri mwebwe meze nk'uwubakorera.

28Ni mwebwe mwamanye nanje mu vyo nageragejwe.

29Nanje ndababikiye ubwami, nk'uko Data ya bumbikiye,

30ngo muzorire, munywere ku meza yanje mu bwami bwanje; kandi muzokwicara ku ntebe z'icubahiro mucire imanza imiryango y'Abisirayeli, uko ari icumi n'ibiri.

31Aravuga ati: "Simoni, Simoni, raba Satani yabasavye ngo abagosore nk'ingano;

32ariko wewe nagusengeye ngo ukwizera kwawe ntiguhere." Nawe ni wamara guhinduka, uzoremeshe incuti zawe.”

33Aramubwira ati: "Mugenzi, niteguye kujana nawe no mw'ibohero no mu rupfu.”

34Aramubwira ati: "Petero, ndakubwire, Inkoko itarabika uwu musi, uhava unyihakana gatatu ngo ntunzi.”

35Kandi arababaza ati: "Hamwe nabatuma mudafise umupfuko w' amahera canke isaho canke ibirato, hari ico mwabuze?" Baramwishura bati: "Nta co twabuze.”

36Arababwira ati: "Ariko noneho, uwufise umupfuko w'amahera awujane, n'uwufise isaho ayijane; kandi uwudafise inkota, ashore impuzu yiwe ayigure.”

37Ndababwire, Ibi vyanditswe bikwiye kunshikako, ngo Yaharuranywe n'abanyabicumuro. Kuko ivyanje bigira bishike.

© 2007 Bible Society of Burundi.

38Baramubwira bati: "Mushingantahe, ehe, ngizi inkota zibiri." Arababwira ati: "Ziramaze."

39Arasohoka, aja ku musozi wa Elayono, nk'uko yamenyereye; abigishwa biwe na bo baramukurikira.

40Ashitse aho hantu, arababarira ati: "Ni musenge, kugira ngo ntimuje mu mosha mabi."

41Atandukana na bo, ashika nk' ahoterwa ibuye, arapfukama, arasenga

42ati: "Data, asangwa ubigomba, kura iki gikombe, kindengane: ariko ntibibe uko jewe ngomba, yamara bibe uko wewe ugomba."

43Umumarayika aramwiyereka, avuye mw'ijuru, amutera intege.

44Arushirije kwicwa n'umubabaro, ashishikara gusenga cane, icuya ciwe kiba nk'ibitonyanga binini vy'amaraso bitonyanga hasi.

45Amaze gusenga, ava hasi aja aho abigishwa bari, asanga basinzirijwe n'umubabaro.

46Arababaza ati: "Ni igiki gitumye musinzira? Ni muvyuke, musenge, ntimuje mu mosha mabi."

47Akivuga, haza igitero kizanywe n'uwitwa Yuda, umwe muri bamwe icumi na babiri, abagiye imbere; yegera Yesu, ngo amusome.

48Yesu aramubaza ati: "Yuda, mbega utangisha Umwana w'umuntu kumusoma?"

49Abari kumwe na we babonye ibigira bibeho, baramubaza bati: "Mugenzi, tubakubite inkota?"

50Umwe muri bo ayikubita umusavyi w'umuherezi mukuru, amuca ugutwi kw'i buryo.

51Yesu arababarira ati: "Geza aho." Akora ku gutwi kwiwe, aramukiza.

52Yesu abaza abaherezi bakuru n'abakuru b'abacungera irembo b'urusengero n'abashingantahe bamuziriye ati: "Mbega munziriye nk'umwambuzi, muzanye inkota n'amahiri?

53Imisi yose namana namwe mu rusengero ko mutaramvuye amaboko ngo mumfate; ariko iki n'igihe canyu n'ico ububasha bw'umwiza."

54Baramufata, baramujana, bamwinjiza mu nzu y'umuherezi mukuru, ariko Petero amuja inyuma barenga arenguka.

55Bacanye umuriro mu rugo hagati, bicaye hamwe, Petero yicara hagati muri bo.

56Incoreke imubona yicaye ahabona, imwitegereje iravuga iti: "N'uwu yari kumwe na we."

57Na we arabihakana ati: "Eka nyina wanje, sindanamuzi."

© 2007 Bible Society of Burundi.

58Hashize akanya gato, uwundi aramubona, aramubwira ati: "Nawe nyene uri uwo muri bo." Petero aramwishura ati: "Eka wa muntu, si jewe."

59Hashize umwanya nk'isaha imwe, uwundi abivuga ashimitse ati: "Ni ivyo ukuri, uwu yari kumwe na we, bitayeko n'Umunyagalilaya."

60Petero aramubwira ati: "Eka wa muntu, sinzi n'ivyo uvuze." Akivuga, uwo mwanya inkoko irabika.

61Umwami Yesu arakebuka, yitegereza Petero. Petero yibuka rya jambo ry'Umwami, ingene yamubwiye ati: "Uwu musi inkoko itarabika, uja kunyihakana gatatu." "

62Arenga irembo, araturika ararira.

63Abagabo bari bafashe Yesu baramushinyagurira, baramushishagura,

64bamupfuka mu maso, baramubaza bati: " "Pfindura: ni nde agukubise?" "

65N'ibindi vyinshi babimuvuga bamutuka.

66Iryo joro rikeye, hakorana abashingantahe b'ubwo bwoko, ni bo baherezi bakuru n'abahinga b'ivyanditswe, bamujana mw'ikoraniro ry'abashingantahe ryabo, baramubaza

67bati: " "Namba uri Kristo, tubwire." Arababwira ati: "N'iyo nobabwira, ntimwovyemera;

68n'iyo nobabaza, ntimwonyishura."

69Ariko uhereye ubu Umwana w'umuntu azoba yicaye i buryo bw'ububasha bw'Imana.

70Bose baramubaza bati: "None rero uri Umwana w' Imana?" Arabishura ati: "Muravyivugiye ko ndi we."

71Bati: "Turacaronderera iki ivyabona? Kuko ubwacu tuvyiyumviye ibivuye mu kanwa kiwe.

## Luka 23

1Iryo koraniro ryose riva hasi, bamujana kwa Pilato.

2Batangura kumwagiriza bati: "Uwu twamubonye agumura ubwoko bwacu, ababuza gutanga ikori rya Kayisari, yivuga ngo ni Kristo, Umwami."

3Pilato aramubaza ati: "Ni wewe Mwami w'Abayuda?" Na we aramwishura ati: "Uravyivugiye."

4Pilato abwira abaherezi bakuru n'ishengero ati: "Nta kibi mbona kuri uwo muntu."

5Na bo barashimika bati: "Asibanganya igihugu, yigisha i Yudaya hose; yahereye i Galilaya none ageza n'ino." "

6Pilato avyumvise, abaza yuko uwo muntu ari Umunyagalilaya.

© 2007 Bible Society of Burundi.

7 Amenye yuko ari uwo mu gihugu ca Herode, amurungika kwa Herode, kuko na we yari i Yerusalemu muri iyo misi.

8 Herode abonye Yesu aranezerwa cane, kuko yahereye kera yipfuza kumuraba, kuko yahora yumva ivyiwe, kandi yaziga ko yobona ikimenyetso yokora.

9 Amubaza amajambo menshi, ntiyamwishura na rimwe.

10 Abaherezi bakuru n'abahinga b'ivyanditswe barahagarara, bakovya kumwagiriza cane.

11 Herode aramutitura, hamwe n'abasoda biwe, aramushinyagurira, maze amwambika impuzu itukura y'agaciro, amusubiza kwa Pilato.

12 Uwo musi nyene Herode na Pilato baca barakundana kandi bari basanzwe bankana.

13 Pilato akoranya abaherezi bakuru n'abashingantahe n'abantu,

14 arababwira ati: " "Mwanzaniye uwu muntu ngo agumure abantu; none jewe namusambishije imbere yanyu, nta caha mbona kuri we ku vyo mwamureze.”

15 Na Herode ni uko, kuko yamudushubije; kandi raba nta co yakoze gikwiye kumwicisha.

16 Nuko ndamukubita, ndamurekure.

[ 17 Kuko yari akwiye kubarekurira imbohe imwe muri iyo misi mikuru. ]

18 Ariko bose basemererera icarimwe bati: "Kuraho uwo, uturekurire Baraba.”

19 Uwo yari yashizwe mw'ibohero bamuhoye ukugarariza kwabaye muri ico gisagara, bo n'ubwicanyi.

20 Pilato yongera kubabwira, kuko agomba kurekura Yesu.

21 Ariko bo barayogora bati: "Mubambe, mubambe.”

22 Ababaza ubugira gatatu ati: "Ku ki? uwu yakoze ikibi giki? Sindamubonako igikwiye kumwicisha; nuko ndamukubita, ndamurekure.”

23 Ariko bakovya kuyogora bavuga n'amajwi arenga, bamusaba ko abambwa, amajwi yabo aramunesha.

24 Nuko Pilato aca urubanza nk'uko bamusavye.

25 Arekura uwashizwe mw'ibohero bamuhoye ubugarariji n'ubwicanyi, uwo basavye; maze atanga Yesu ngo agirwe uko bagomba.

26 Bakimujana, bafata umuntu yitwa Simoni Umunyakurene, avuye mu mihana, bamukorera umusaraba, ngo awikorere akurikiye Yesu.

27 Ishengero ry'abantu ryinshi riramukurikira, ririmwo n'abagore bamuborogera, bamuborogera.

© 2007 Bible Society of Burundi.

28Yesu arakebuka ati: "Yemwe bakobwa b'i Yerusalemu, ntimundirire, ariko mwiririre n'abana banyu,

29kuko imisi izoza bazovuga bati: 'Garahiriwe abagumbashe n'inda zitigeze kuvyara n'amabere atigeze kwonsa.'“

30Ni ho bazotangura kubarira imisozi bati: "Ni mutugweko;" n'imirambi bati: "Ni mudupfuke.”

31Ko bagirira batyo igiti kibisi, none icumye kizogirirwa gite?

32Bamujanana n'inkozi z'ikibi zibiri ngo zicanwe na we.

33Bashitse ahantu hitwa Nyagihanga, bamubambanaho na za nkozi z'ibibi, umwe i buryo bwiwe, uwundi mu bubamfu.

34Yesu aravuga ati: "Data, n'ubaharire, kuko batazi ico bakora." Bagabura impuzu ziwe, bakoresheje ubupfindo.

35Abantu bahagarara baraba. Abashingantahe na bo bamutwengera mw'ijigo bati: "Yakijije abandi, ni yikize, namba ari Kristo w'Imana, uwatoranijwe na yo.”

36N'abasoda baramucurira, baramwegera, bamuha inkarisha,

37baramubarira bati: "Ni waba uri Umwami w'Abayuda, ni wikize.”

38Hejuru yiwe kandi hari icandiko canditswe, ngo uwu NI UMWAMI W'ABAYUDA.

39Umwe mu nkozi z'ibibi zibambwe aramutuka ati: "Si wewe Kristo? Ni wikize, natwe udukize.”

40Ariko uwa kabiri amwishura amuhana ati: "No kwubaha Imana ntuyubaha, kandi uciriwe urubanza rumwe n'urwiwe?”

41Tweho turishuye, kuko tugiriwe ibihwanye n'ivyo twakoze; ariko uwu nta kibi yakoze.

42Kandi aravuga ati: "Urahava uzonyibuke Yesu, aho uzozira mu bwami bwawe.”

43Aramwishura ati: "Ndakubwire ukuri, uwu musi urabana nanje muri Paradiso.”

44Kandi hari nk'isaha zitandatu, ubwirakabiri bukorana mu gihugu cose, bushitsa kw'isaha y'icenda

45izuba ryazimanganye. Igihuzu gikingiriza ahera cane h'urusengero gitabukamwo kubiri.

46Yesu amaze gusemerera n'ijwi rirenga, aravuga ati: "Data, nshize ubugingo bwanje mu maboko yawe." Ahejeje kuvuga atyo aracikana.

47Intwazangabo z'abasoda ijana abonye ibibaye, ahimbaza Imana ati: "Ni ukuri uwu muntu yari umugororotsi.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

48Ishengero ryose ryari ribikungereye, babonye ibibaye basubira inyuma bamuborogera.

49Abazinanyi na Yesu bose n'abagore bari bavanye i Galilaya na we bari bahagaze kure babiraba.

50Maze hari umuntu yitwa Yosefu, yari umushingantahe mu nama nkuru, kandi Yari umunyangeso nziza agororotse.

51Uwo ntiyari yafatanije inama n'abandi n'ivyo bakoze; yari Umunyarimataya, igisagara c'Abayuda, yari areretse ubwami bw'Imana.

52Uwo aja kwa Pilato, asaba ikiziga ca Yesu.

53Arakibambura, akizingira mu mpuzu yera, agishira mu mva yimbwe mu bitandara, itarahambwamwo umuntu.

54Wari umusi wo Kwitegura, isabato igira ishike.

55Abagore bari bavanye na Yesu i Galilaya bakurikira Yosefu, babona iyo mva, n'ingene ikiziga ciwe gishizwemwo.

56Basubira inyuma, bategura ibimota neza n'amavuta amota cane. Kandi kw'isabato bararuhuka, nk'uko vyagezwe.

## Luka 24

1Ku wa mbere w'indwi kare mu mutwenzi baja kuri ya mva, bajanye vya bimota neza bateguye.

2Basanga ikibuye gitembagajwe kivuye ku mva;

3binjirayo ntibasangamwo ikiziga c'Umwami Yesu.

4Ivyo bikibazazaniye, abagabo babiri bahagarara i ruhande yabo, bambaye impuzu zikayangana.

5Bagitinye, bunamitse amaso hasi, barababaza bati: "Ni igiki gitumye muronderera uwuriho, ahantu h'abapfuye?”

6Ntari hano, ariko yazutse. Mwibuke uko yababwiye, akiri i Galilaya

7ati: "Umwana w'umuntu akwiye gushirwa mu maboko y'abanyavyaha, no kubambwa, no kuzuka ku musi ugira gatatu." “

8Bibuka ya majambo yiwe.

9Bava mu mva, basubira inyuma, ivyo vyose babibarira bamwe icumi n'umwe n'abandi bose.

10Abo bagore ni Mariya Magadalene, Yowana na Mariya nyina wa Yakobo; kandi n'abandi bagore bari kumwe na bo, babarira intumwa ivyo.

11Ayo majambo ababera nk'umuyaga, ntibabemera.

© 2007 Bible Society of Burundi.

12Ariko Petero ava hasi, yirukira ku mva, arunama, arungurukamwo, abona impuzu zera ziri zonyene; asubira i we, atangajwe n'ibibaye.

13Uwo musi nyene babiri muri bo bari mu nzira baja mu mihana ahitwa Emawusi, ni nko ku birometero icumi na kimwe uvuye i Yerusalemu,

14bavugana ivyabaye vyose.

15Bakivugana babazanya, Yesu ubwiwe arabegera, ajana na bo.

16Ariko amaso yabo atabwamwo uruhuni ngo ntibamumenye.

17Arababaza ati: " "Mbega ivyo mugenda murabazanya ni ibiki?" Barahagarara, bijiriwe.

18Umwe muri bo yitwa Kileyopa aramwishura ati: "Mbega ni wewe gusa watse indaro i Yerusalemu, utazi ivyabayeyo muri iyi misi?”

19Arababaza ati: "Ni ibiki?" Baramwishura bati: "Ni ivya Yesu Umunyanazareti, yari umuntu avugishwa n'Imana, akaba umunyabushobozi bwinshi mu vyo yakora no mu vyo yavuga, imbere y'Imana n'imbere y'abantu bose:

20n'ivyo uko abaherezi bakuru n'abashingantahe bacu bamutanze ngo acirwe urubanza rwo gupfa, bakamubamba.”

21Kandi twari twishimiye yuko ari we azocungura Abisirayeli. Kandi ikigeretseko, uwu ni umusi ugira gatatu uhereye aho ivyo vyabereye.

22Kandi n'abagore bo muri twebwe badutangaje, bazindutse baja ku mva;

23babuze ikiziga ciwe, baraza batubarira yuko abamarayika babiyeretse bavuga yuko ariho.

24Kandi na bamwe mu bari kumwe natwe bagiye ku mva basanga ari ko biri, uko abo bagore batubariye; ariko we ntibamubona.

25Arababwira ati: "Yemwe mwa mburabwenge, imitima yanyu itevye cane kwizera ivyo abavugishwa n'Imana bavuze vyose !”

26Mbega Kristo ntiyari akwiye kubabazwa atyo ngo abone kuja mu bwiza bwiwe?

27Atangurira kuri Mose no ku bavugishwa n'Imana bose, abasobanurira mu vyanditswe vyose ivyamwanditsweko.

28Bashitse hafi y'umuhana bajako, amera nk'uwugomba kuwurengana.

29Baramugobera bati: "Gumana natwe, kuko bugira bwire kandi umusi ukuze cane. Arinjira ngo agumane na bo.”

30Yicaye ngo asangire na bo, yakira umutsima, arawuhezagira, arawumanyagura, arawubaha.

31Uruhuni rubava ku maso, baramumenya: maze arakamangana, ntibaba bakimubona.

© 2007 Bible Society of Burundi.

32 Baravugana bati: "Mbega imitima yacu ntiyari iriko irasimbagurika, aho yariko aravugana natwe mu nzira, aduhishurira ivyanditswe!”

33 Ako kanya nyene, basubira i Yerusalemu, basanga bamwe icumi n'umwe bakoranye, bo n'abari kumwe na bo,

34 kandi bavuga bati: "Ni ukuri Umwami Yesu yazutse, kandi yabonywe na Simoni.”

35 Na bo babadondera vya bindi vyo mu nzira, kandi yuko bamumenyeshejwe n'uko yamanyaguye umutsima.

36 Bariko baravuga ivyo, Yesu ubwiwe ahagarara hagati muri bo, arababwira ati: "Amahoro abe muri mwebwe.”

37 Ariko bafatwa n'ubwoba bacika ivutu, bagira ngo n'umuzimu babonye.

38 Arababaza ati: "Ni igiki kibahagaritse imitima? Kandi mwibaza iki mu mitima yanyu?”

39 Ni murabe ibiganza vyanje n'ibirenge vyanje, mumenye ko ari jewe ubwanje. Ni munkorakore, murabe, kuko umuzimu utagira inyama n'amagufa, nk'ivyo mumbonana.

40 Avuze ivyo, abereka ibiganza vyiwe n'ibirenge.

41 Akanyamuneza kakibabujije kuvyemera, bariko baratangara, arababaza ati: "Hari utwo kurya mufise hano?”

42 Bamuha igice c'ifi yokeje,

43 aracakira, akirira imbere yabo.

44 Arababwira ati: "Aya ni amajambo yanje nababwira nkiri kumwe namwe, y'ingene ivyanditswe kuri jewe vyose mu vyagezwe vya Mose no mu majambo y'abavugishwa n'Imana no muri Zaburi bikwiye gushika.”

45 Maze abungura ubwenge ngo batahure ivyanditswe.

46 Arababwira ati: "Ni ko vyanditswe yuko Kristo akwiye kubabazwa no kuzuka mu bapfuye ku musi ugira gatatu,

47 kandi yuko ukwihana n'uguharirwa ivyaha bikwiye kuvugwa mw'izina ryiwe mu mahanga yose, uhereye i Yerusalemu.

48 Namwe muri ivyabona vyo kuvuga ivyo.

49 Umve, ngira ndabarungikire ico Data yasezeranye; ariko mugume mu gisagara, kugeza aho muzokwambikirwa ubushobozi buvuye mw'ijuru.

50 Abavanaho, abashitsa aharabana n'i Betaniya, aterura amaboko, arabahezagira.

51 Akibahezagira, atandukanywa na bo, aduzwa mw'ijuru.

52 Na bo baramusenga, basubira i Yerusalemu bafise akanyamuneza kenshi.

© 2007 Bible Society of Burundi.

53Bama mu rusengero ubudasiba bashima Imana.

© 2007 Bible Society of Burundi.

# Yohana

## Yohana 1

1Mu ntango Jambo yariho, kandi Jambo yahoranye n'Imana, kandi uwo Jambo yari Imana.

2Uwo yahoranye n'Imana mu ntango;

3vyose vyaremwe na we, mu vyaremwe vyose nta kintu na kimwe kitaremwe na we.

4Muri we harimwo ubugingo, kandi ubwo bugingo bwari umuco w'abantu.

5Uwo muco wakira mu mwiza, ariko umwiza ntiwawakiriye.

6Haje umuntu yatumwe n' Imana, izina ryiwe ni Yohana;

7ni we yazanywe no kuba icabona, ngo ashingire intahe umuco, kugira ngo bose bizere kubwiwe.

8Si we yari wa muco, ariko kwari ugushingira intahe umuco.

9Umuco w'ukuri, wakira umuntu wese, wariko uraza muri iyi si.

10Yari mw'isi, kandi isi yaremwe na we, ariko'isi ntiyamumenya;

11yaje mu vyiwe, ariko abiwe ntibamwakiriye.

12Ariko abamwakiriye bose bakamwizera yabahaye ububasha bwo gucika abana b'Imana.

13Abo ntibavyawe n'amaraso, canke n'ukwifuza kw'umubiri, canke n'ukwifuza kw'umugabo, ariko bavyawe n'Imana.

14Kandi uwo Jambo yihaye umubiri, abana natwe, twitegereza ubwiza bwiwe, n'ubwiza bumeze nk'ubwo Umwana w'ikinege ava kwa Se, yuzuye ubuntu n'ukuri.

15Yohana amushingira intahe, arasemerera ati: "Uwo ni we navuze ko uwuza inyuma yanje ni we yari uwa mbere kuri jewe, kuko yariho ntarabaho." “

16Kandi twese twahawe ku vyuzuye muri we, tugirirwa ubuntu bugerekeranye n'ubundi.

17Kuko ivyagezwe vyazanywe na Mose, ubuntu ni ukuri vyazanywe na Yesu Kristo.

18Nta muntu yigeze kubona Imana na rimwe; Umwana w'ikinege aba mu gikiriza ca Se ni we yayimenyekanishije.

19Uku ni ko Yohana yashinze intahe igihe Abayuda bamutumako abaherezi n'Abalewi bavuye i Yerusalemu ngo bamubaze bati: " "Uri nde?”

20Na we aravyatura, ntiyahisha ukuri, aravyatura ati: "Si jewe Kristo.”

21Baramubaza bati: "None se bimeze bite? Uri Eliya?" Ati: "Sindi we." Bati: "Uri wa muntu avugishwa n'Imana?" Ati: "Oya.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

22Baramubaza bati: "None uri nde, ngo tuje kwishura abadutumye? Kuri wewe wivuga ute?”

23Ati: "Ndi ijwi ry'uwusemererera mu bugaragwa rivuga ko mugorora inzira y'Uhoraho, nk'uko uwavugishwa n'Imana Yesaya yavuze.”

24Kandi abo batumwe bari Abafarisayo;

25baramubaza bati: "None ubatiriza iki, ko utari Kristo, ntube Eliya canke wa muntu avugishwa n'Imana?”

26Yohana arabishura ati: "Jeho mbatiza mu mazi; hagati muri mwebwe hahagaze uwo mutazi,

27ni we aza inyuma yanje, kandi jewe ntibimbereye gupfundurura akagozi k'ibirato vyiwe." “

28Ivyo vyabereye i Betaniya, hakurya ya Yorodani aho Yohana yabatiriza.

29Bukeye bw'aho abona Yesu aza kuri we, aravuga ati: " "Nguwu Umwagazi w'intama w'Imana ukuraho icaha c'abari mw'isi.”

30Uwo ni we navuze nti: "Inyuma yanje hazoza umuntu yari uwo imbere kuri jewe, kuko yariho ntarabaho.

31Nanje sinaribwamumenye, ariko kugira ngo yerekwe Abisirayeli, ni co catumye nanje nza mbatiza mu mazi.”

32Kandi Yohana ashinga intahe ati: "Nabonye Mpwemu amanuka ava mw'ijuru asa n'inuma, aguma kuri we;

33kandi jewe sinaribwamubone, ariko Uwantumye kubatiza mu mazi, ni we yambariye ko uwo nzobona Mpwemu amanuka amujeko, akamugumako, ni we abatiza muri Mpwemu Yera.

34Nanje narabibonye, narabishingiye intahe yuko uwo ari Umwana w'Imana.”

35Bukeye bw'aho, Yohana yongeye guhagararana na babiri mu bigishwa biwe,

36yitegereza Yesu agendagenda, aravuga ati: "Nguwu Umwagazi w'intama w' Imana.”

37Abo bigishwa babiri bumvise uko avuga, bakurikira Yesu.

38Yesu akebutse, abona bamukurikiye, arababaza ati: "Murondera iki?" Baramubwira bati: "Rabi" (risobanurwa ngo Mwigisha), " usembereye hehe?”

39Arababwira ati: "Ni muze muharabe." Nuko baragenda, babona aho yatse indaro, basibira aho ari uwo musi, hari nk'isaha icumi.

40Andereya mwene nyina wa Simoni Petero, yari umwe muri abo babiri bumvise Yohana, bagakurikira Yesu.

41Uwo abanza kurondera mwene nyina Simoni, aramubwira ati: "Twabonye Mesiya." (risobanurwa ngo Kristo).

© 2007 Bible Society of Burundi.

42Amujana kuri Yesu. Yesu aramwitegereza, aramubwira ati: "Uri Simoni umwana wa Yohana; uzokwitwa Kefa " "(risobanurwa ngo Petero).

43Bukeye bw'aho Yesu agomba kuvayo ngo aje i Galilaya, abona Filipo, aramubarira ati: " "Nkurikira.”

44Kandi uwo Filipo, i wabo ni i Betsayida, igisagara c'i wabo wa Andereya na Petero.

45Filipo abona Natanayeli, aramubwira ati: "Uwo Mose yanditse mu vyagezwe, n'abavugishwa n'Imana bakamwandika, twamubonye, ni Yesu w'i Nazareti, umwana wa Yosefu.”

46Natanayeli aramubaza ati: "Mbega i Nazareti hova iciza?" Filipo aramubwira ati: "Ni uze urabe.”

47Yesu abona Natanayeli aza kuri we, amuvugako ati: "Ehe Umwisirayeli vy'ukuri, atarimwo uburyarya.”

48Natanayeli aramubaza ati: "Wamenyeye hehe?" Yesu aramwishura ati: "Filipo ataraguhamagara, aho wari musi y'umusukoni, nakubonye.”

49Natanayeli na we aramwishura ati: "Mwigisha, uri Umwana w'Imana, ni wewe Mwami w'Abisirayeli.”

50Yesu aramwishura ati: "Wijejwe n'uko ndakubwiye ko nakubonye uri musi y'umusukoni? Uzobona ibiruta ivyo.”

51Arongera aramubwira ati: "Ni ukuri ndababwira koko yuko muzobona ijuru rikingurutse, kandi abamarayika b'Imana baduga bamanuka ku Mwana w'umuntu."

## Yohana 2

1Kw'igenekerezo rya gatatu haba ubukwe i Kana i Galilaya, kandi nyina wa Yesu ni ho yari ari.

2Yesu na we atorerwa ubukwe, bo n'abigishwa biwe.

3Maze umuvinyu ukamye, nyina wa Yesu aramubarira ati: "Nta muvinyu bafise.”

4Yesu aramwishura ati: "Duhuriye hehe ga nyina wanje? Igihe canje ntikiragera.”

5Nyina abwira abakozi ati: "Ico ababwira cose mugikore.”

6Hariho impange z'intango zitandatu z'amazi zabajwe mu mabuye, zateretsweho kubwo ukwihumanura nk'uko umugenzo w'Abayuda wari uri, imwimwe yuzuzwa n'ibibindi bibiri canke bitatu.

7Yesu arababarira ati: "Ni mwuzuze izo ntango amazi." Bazuzuza kugeza ku mbiga.

8Arababarira ati: "Mudahe ubu nyene, mushire umuteretsi mukuru." Baramushira.

9Umuteretsi yumvirije amazi yahindutse umuvinyu, ntiyamenye iyo ivuye, ariko abakozi badashe amazi bari babizi; uwo muteretsi ahamagara umukwe,

© 2007 Bible Society of Burundi.

10aramubwira ati: "Umuntu wese ahora abanza gutereka umuvinyu uryoshe, maze bahimba akabaha izitaryoshe; ariko weho iziryoshe ni zo wabitse gushitsa ubu.”

11Iryo ni ryo tanguriro ry'ibimenyetso Yesu yakoze ari i Kana i Galilaya, yerekana ubwiza bwiwe; kandi abigishwa biwe baramwizera. “

12Hanyuma y'ivyo amanuka i Kaperinawumu, bo na nyina n'abavukanyi biwe n'abigishwa biwe, amarayo imisi itari myinshi.

13Kandi Pasika y'Abayuda yari hafi; Yesu aduga i Yerusalemu. “

14Asanga mu rusengero abadandarizaho inka, intama, inuma n'abavunja amahera bicaye.

15Atsiba imigozi ayigira nk'ikimoko, abahinda mu rusengero bose, n'intama n'inka, asesa amahera y'abariko baravunja, ahenura imeza zabo.

16Abarira abadandaza inuma ati: "Ni mukureho ivyo, nta co muhindura inzu ya Data kuba inzu y'isoko.”

17Abigishwa biwe bibuka ko handitswe, ngo ishaka ry'inzu yawe rizondya.

18Abayuda baramubaza bati: "Utwereka ikimenyetso ki, gituma ukora ivyo?”

19Yesu arabishura ati: "Ni musambure uru rusengero, nanje nzoruhagarika mu misi itatu.”

20Maze Abayuda bati: "Uru rusengero rwubatswe imyaka mirongo ine n'itandatu; none wewe uzoruhagarika mu misi itatu?" “

21Ariko we yavuga urusengero rw'umubiri wiwe.

22Nuko amaze kuzuka mu bapfuye, abigishwa biwe bibuka yuko yari yaravuze ivyo, bemera icanditswe, na rya jambo Yesu yavuze.

23Kandi yari i Yerusalemu mu misi mikuru ya Pasika, benshi bizera izina ryiwe, babonye ibimenyetso akora.

24Ariko Yesu we ntiyabishimira, kuko yari azi abantu bose,

25ntiyarinda ko hogira uwushingira intahe ivyo umuntu kuko ubwiwe yari azi ibiri mu muntu."

## Yohana 3

1Hari umuntu mu Bafarisayo, yitwa Nikodemu, yari umukuru wo mu Bayuda;

2Uwo aza kuri we mw'ijoro, aramubwira ati: "Mwigisha, turazi yuko uri umwigisha yavuye ku Mana, kuko ata muntu ashobora gukora ibimenyetso nk'ivyo ukora, kiretse Imana iri kumwe na we.”

3Yesu aramwishura ati: "Ni ukuri ndakubwire koko. Iyo umuntu atavyawe ubwa kabiri, ntashobora kubona ubwami bw'Imana.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

4Nikodemu aramubaza ati: "Umuntu ashobora ate kuvyarwa ashaje? Mbega yoshobora gusubira mu nda ya nyina akavuka?"

5Yesu aramwishura ati: "Ni ukuri ndakubwire koko. Iyo umuntu atavyawe n'amazi na Mpwemu, ntashobora kwinjira mu bwami bw' Imana.

6Ikivyawe n'umubiri na co ni umubiri; ikivyawe na Mpwemu na co ni impwemu."

7Ntutangazwe n'uko ndakubwiye nti: "Murakwiye kuvyarwa ubwa kabiri.

8Umuyaga uhuhuta aho ugomba, nawe ukumva igihuhuta cawo, ariko ntumenye aho uva, n'aho uja; uko ni ko amera, uwuvyawe na Mpwemu wese."

9Nikodemu aramubaza ati: "Ivyo bishoboka bite?"

10Yesu aramwishura ati: "Ni wewe mwigisha w'Abisirayeli, kandi ntutahura ivyo?"

11Ni ukuri ndakubwire koko: twebwe tuvuga ico tuzi, kandi dushingira intahe ico twabonye; ariko ntimwemera igishingantahe cacu.

12Ko nababwiye ivyo isi ntimwemere, none muzokwemera mute ni nababwira ivyo ijuru?

13Nta waduze mw'ijuru, atari uwamanutse ava mw'ijuru, ni we Mwana w'umuntu wo mw'ijuru.

14Kandi uko Mose yamanitse inzoka mu bugaragwa, ni ko Umwana w'umuntu akwiye kumanikwa,

15ngo uwumwizera wese ahabwe ubugingo budashira."

16Kuko Imana yakunze urukundo abari mw'isi ari rwo rwatumye itanga umwana wayo w'ikinege, ngo uwumwizera wese ntazopfe rubi, ariko ahabwe ubugingo budashira.

17Kuko Imana itatumye Umwana wayo gucira urubanza abari mw'isi, ariko yamutumye ngo abari mw'isi bakizwe na we.

18Uwumwizeye ntazotsindwa n'urubanza, ariko uwutamwizeye aramaze gutsindwa, kuko atizeye izina ry'Umwana w' Imana w'ikinege.

19Uku ni kwo gutsindwa, kuko umuco waje mw'isi, ariko abantu bagakunda umwiza kuruta umuco, kuko ibikorwa vyabo ari bibi.

20Kuko uwukora ibibi wese yanka umuco, kandi ntaza ku muco, kugira ngo ibikorwa vyiwe ntibihanwe.

21Ariko uwukora ivyo ukuri aza ku muco, kugira ngo ibikorwa vyiwe biseruke ko vyakorewe mu Mana.

22Hanyuma y'ivyo Yesu ajana n'abigishwa biwe mu gihugu c'i Yudaya, atebanayo na bo, abatiza.

23Kandi Yohana na we yabatiriza ahitwa Ayinoni, hafi y'i Salimu, kuko aho hari amazi menshi, abantu baraza bakabatizwa,

© 2007 Bible Society of Burundi.

24kuko Yohana ataribwashirwe mw'ibohero.

25Havyuka ibihari ku bigishwa ba Yohana n'Umuyuda ku vyo kwihumanura.

26Baza aho Yohana ari, baramubwira bati: "Mwigisha, uwo mwari kumwe hakurya ya Yorodani, umwe washingira intahe, erega na we ariko arabatiza, kandi bose baza kuri we.”

27Yohana arabishura ati: "Nta co umuntu ashobora kwironsa ubwiwe, atagihawe kivuye mw'ijuru.”

28Ni mwebwe ubwanyu munshingira intahe yuko navuze nti: "Si jewe Kristo, ariko natumwe kumwitangira imbere.”

29Uwuhawe umugeni ni we mukwe, ariko umugenzi w'uno mukwe amuhagaraye i ruhande amwumva, anezerwa cane n'ijwi ry'umukwe; nuko ako kanyamuneza kanje karashitse.

30Urya akwiye gukuzwa, nanje ngirwe muto.

31Uwavuye hejuru ni we asumba bose, uwo mw'isi aba ari uwo mw'isi nyene, avuga ivyo isi; uwavuye mw'ijuru ni we asumba bose.

32Ico yabonye, kandi yumvise, ni co ashingira intahe, ariko ugushinga intahe kwiwe nta wukwemera.

33Uwemeye ugushinga intahe kwiwe aba ateye igikumu ngo Imana ni iyo ukuri.

34Uwo Imana yatumye, ni we avuga amajambo y'Imana, kuko idatanga Mpwemu ku ngero.

35Se arakunda Umwana, kandi yamuhaye vyose, abishira mu kuboko kwiwe.

36Uwizeye Umwana arafise ubugingo budashira, ariko uwutumvira Umwana ntazobona ubugingo, ariko ishavu ry'Imana riguma kuri we.

## Yohana 4

1Umwami Yesu amenye ko Abafarisayo bumvise yuko aronka abigishwa benshi, kandi abatiza benshi, arusha Yohana,

2(ariko Yesu ubwiwe si we yabatiza, bari abigishwa biwe),

3ava i Yudaya, asubira i Galilaya.

4Yumva akwiye guca i Samariya.

5Nuko ashika ku gisagara c'i Samariya citwa Sukara, hafi y'umusozi Yakobo yahaye Yosefu, umuhungu wiwe,

6kandi aho hari iriba rya Yakobo. Yesu ananijwe n'urugendo apfa kwicara kw'iriba, hari nk'isaha zitandatu.

© 2007 Bible Society of Burundi.

7Haza umugore w'Umusamariyakazi kuvoma; Yesu aramubwira ati: "Ni umpe utwo kunywa.”

8Kuko abigishwa biwe bari bagiye mu gisagara kugura indya.

9Uno Musamariyakazi aramubaza ati: "Wewe uri Umuyuda, none unsaba amazi ute, jewe ndi Umusamariyakazi ?" Ni kuko Abayuda n'Abasamariya banenana. )

10Yesu aramwishura ati: "Iyo uba wari uzi ingabire y'Imana, ukamenya n'uwugusavye ngo Mpa utwo kunywa uwo ari we, nawe uba umusavye, na we akaguha amazi y'ubugingo.”

11Wa mugore aramwishura ati: "Mugenzi, ko ata co kuvomesha ufise, kandi iriba rikaba ari rirerire, ubwo ayo mazi y'ubugingo uyakura hehe?”

12Mbega uruta sogokuruza wacu Yakobo, yaduhaye iri riba, yanywa amazi yaryo, ubwiwe n'abana biwe, n'amasho yiwe?”

13Yesu aramwishura ati: "Uwunywa kuri ayo mazi wese azosubira kugira inyota;

14ariko uwunywa amazi nzomuha, ntazoba akigira inyota na mba gushitsa ibihe vyose, ariko amazi nzomuha azohinduka muri we imbizi y'amazi yiburuka azana ubugingo budashira.”

15Uwo mugore aramubwira ati: "Mugenzi, mpa rero ayo mazi, sinzogire inyota, kandi sinzogaruka kuvoma ino hose.”

16Yesu aramubwira ati: "Genda uhamagare umugabo wawe, uheze ugaruke ino.”

17Uwo mugore aramwishura ati: "Nta mugabo mfise." Yesu aramubwira ati: "Uvuze ko, ko ugize ngo nta mugabo ufise,

18kuko wari ufise abagabo batanu, ariko uwo ufise ubu si umugabo wawe; ivyo ubivuze ukuri.”

19Uno mugore aramubwira ati: "Mugenzi, ndabona ko uri umuntu avugishwa n'Imana.

20Ba sogokuruza bacu basengera kuri uwo musozi, ariko mweho mugira ngo i Yerusalemu ni ho hantu hakwiye gusengerwa.

21Yesu aramubwira ati: "Nyizera nyina wanje; igihe kija kuza, si kuri uwo musozi canke i Yerusalemu muzosengera Data.

22Mwebwe musenga ico mutazi; tweho dusenga ico tuzi, kuko agakiza gaturuka mu Bayuda.

23Ariko igihe kiza, kandi kirashitse, ni ho abasenga b'ukuri bazosengera Data mu mpwemu no mu kuri, kuko Data arondera abamusenga bameze batyo.

24Imana ni Mpwemu, kandi abayisenga bakwiye kuyisenga mu mpwemu no mu kuri.”

25Nya mugore aramubwira ati: "Ndazi ko Mesiya azoza yitwa Kristo; uwo aho azozira ni we azoduserurira vyose.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

26Yesu aramubwira ati: "Ni jewe nyene turiko turavugana."

27Buno abigishwa biwe barashika, batangazwa n'uko avugana n'umugore; ariko nta wavuze ati: "Urondera iki? Canke ngo Muvuganira na we iki?"

28Maze uno mugore asiga umubindi wiwe hano, asubira mu gisagara, abwira abantu

29ati: "Ni muze murabe umuntu ambariye ivyo nakoze vyose; namba ari we Kristo?"

30Bava mu gisagara ngo bamusange iyo ari.

31Batarashika, abigishwa baramwinginga bati: "Mwigisha, ehe fungura."

32Arabishura ati: "Jewe mfise ivyo kurya mwebwe mutazi."

33Abigishwa barabazanya bati: "Mbega hari uwamuzaniye ivyo kurya?"

34Yesu arababwira ati: "Indya zanje ni ugukora ico uwantumye agomba, no guheraheza igikorwa ciwe."

35Mbega mwebwe ntimuvuga ngo hasigaye amezi ane iyimbura rikagera? Ehe ndababwire, ni mwunamure amaso yanyu murabe imirima ireze igeze kwimbura.

36Umwimbuzi aragererwa, yegeraniriza ivyimburwa mu bugingo budashira; kugira ngo uwubiba n'uwimbura banezeranwe.

37Kuko muri ivyo ari ho iri jambo rimenyekanira ko ari iryo ukuri, ngo Habiba umwe, hakimbura uwundi.

38Nabatumye kwimbura ibitabatamije; abandi baratamye, namwe mwashikiye mu vy'ubutame bwabo.

39Benshi mu Basamariya bo muri ico gisagara bamwizera ku bwo amajambo ya wa mugore, yavuze ashinga intahe ati: "Ambariye ivyo nakoze vyose."

40Maze Abasamariya baje aho ari, baramwinginga ngo agume i wabo; asibirayo kabiri.

41Hizera abandi benshi baruta aba mbere, kuko biyumviye ijambo ryiwe;

42maze babwira uwo mugore bati: "Ubu ho ntitwizeye ku bwo amajambo yawe gusa, kuko natwe twiyumviye kandi tumenye ko uwu ari Umukiza w'isi vy'ukuri."

43Iyo misi ibiri ishize, avayo aja i Galilaya.

44Kandi Yesu ubwiwe yashinze intahe yuko umuntu avugishwa n'Imana atagira icubahiro mu ntara y'i wabo.

45Ashitse i Galilaya, Abanyagalilaya baramwakira, kuko babonye ivyo yakoreye i Yerusalemu vyose muri ya misi mikuru, kuko na bo bari bagiyeyo mu misi mikuru.

46Maze asubira kuja i Kana i Galilaya, hamwe yahindurira amazi agacika umuvinyu.
Hari umutware atwarira umwami, umwana wiwe w'umuhungu yari arwariye i Kaperinawumu;

© 2007 Bible Society of Burundi.

[47]uwo yumvise ko Yesu avuye i Yudaya ashitse i Galilaya, aza kuri we, aramwinginga ngo amanuke gukiza umwana wiwe, kuko yari ku mpfiro.

[48]Yesu aramubwira ati: "Iyo mutabonye ibimenyetso n'ibitangaza nta ho mwizera na mba.”

[49]Uwo mutware ati: "Mugenzi, ngwino se umanuke umwana wanje atarapfa.”

[50]Yesu aramubarira ati: "Ni wigire, umwana wawe ni muzima." Uwo muntu yizera ijambo Yesu amubwiye, aragenda.

[51]Ariko aramanuka abantu biwe baramusanganira bati: "Umwana wawe ni muzima.”

[52]Abasiguza cane igihe yatanguye kworoherwa. Baramubwira bati: "Ejo, kw'isaha indwi, ni ho umururumbo wamuvuyeko.”

[53]Maze se aca amenya ko hari muri nya saha nyene Yesu yamubwiriyemwo ati: "Umwana wawe ni muzima." Arizera ubwiwe n'abo mu rugo rwiwe bose.

[54]Ico ni co kimenyetso ca kabiri Yesu yakoze, avuye i Yudaya ashitse i Galilaya.

## Yohana 5

[1]Hanyuma y'ivyo haba imisi mikuru y'Abayuda; Yesu aduga i Yerusalemu.

[2]Kandi i Yerusalemu hafi y'irembo ry'intama, hari ikidengeri, mu Giheburayo citwa Betesida, cariko amabaraza atanu.

[3]Muri yo hari haryamye abantu benshi barwaye, n'impumyi, n'abacumbagira, n'abanyunyutse. [Bari barorereye ko amazi azikuruka.

[4]Kuko rimwerimwe umumarayika yamanuka aja muri kino kidengeri, akazikurura amazi. Maze uwitangiye gutambukiramwo, amazi azikurutse, ni we yakira indwara yamufashe iyo ari yo yose. ]

[5]Hariho umuntu yarafise indwara ayimaranye imyaka mirongo itatu n'umunani.

[6]Yesu amubonye aryamyeho, kandi amenye ko amaze igihe kirekire, aramubaza ati: "Wumva ugomba gukira?”

[7]Uno arwaye aramwishura ati: "Mugenzi, nta muntu mfise wo kunyinikira mu kidengeri iyo amazi azikurutse; kuko ngira ngo ndaza uwundi akantanga gushungurukiramwo.”

[8]Yesu aramubwira ati: "Va hasi, ikorere ikirago cawe, ugende.”

[9]Buno nyene uwo muntu arakira, yikorera ikirago ciwe, aragenda. Ariko uwo musi hari kw'isabato.

[10]Nuko Abayuda babwira uwakijijwe bati: "Erega ni kw'isabato, ntivyemerwa ko wikorera ikirago cawe.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

11Na we arabishura ati: "Uwankijije ni we yambariye ati: 'Ikorere ikirago cawe, ugende.'"

12Baramubaza bati: "Uwo muntu ni nde yakubariye ngo ikorere ugende?" "

13Ariko uwakijijwe ntiyari azi uwo ari we, kuko Yesu yaciye yigira, kuko aho hantu hari abantu benshi.

14Hanyuma y'ivyo Yesu amubona mu rusengero, aramubwira ati: " "Raba wakize; ntugasubire gukora icaha, kugira ngo ntuzobone ibiruta ivya mbere."

15Uno muntu aragenda, abwira Abayuda ko ari Yesu yamukijije.

16Ni co catumye Abayuda bahama Yesu, kuko yakoze ivyo kw'isabato.

17Yesu arababwira ati: "Data arakora kugeza n'ubu, nanje ndakora."

18Ni co catumye Abayuda barushiriza kurondera ingene bomwica, kuko atakengereye isabato gusa, ariko agatako akita Imana ko ari Se bwite, akiringaniza n'Imana.

19Nuko Yesu asubira kubabwira ati: "Ni ukuri, ni ukuri ndababwire. Nta co Umwana ashobora kwigenera, atabonye Se agikora, kuko ivyo Se akora vyose n'Umwana aca abikora kuno.

20Kuko Se akunda Umwana, akamwereka ivyo akora vyose ubwiwe, kandi azomwereka ibikorwa biruta ivyo, kugira ngo mwebwe mutangare.

21Nk'uko Se azura abapfuye akabaha ubugingo, ni ko n'Umwana aha ubugingo abo agomba.

22Kuko Se ata n'umwe acira urubanza, ariko imanza zose yazishikirije Umwana,

23ngo bose bubahe Umwana nk'uko bubaha Se; uwutubaha Umwana ntaba yubaha Se yamutumye."

24Ni ukuri ndakubwire koko, Uwumva ijambo ryanje, akizera uwantumye, ni we afise ubugingo budashira, kandi ntazoshirwa mu rubanza, ariko aba avuye mu rupfu, ashitse mu bugingo.

25Ni ukuri ndakubwire koko. Igihe kiza, kandi kirashitse, aho abapfuye bazokwumvira ijwi ry'Umwana w'Imana, kandi abazoryumva bazoba bazima.

26Nk'uko Se ari n'ubugingo muri we, ni ko yahaye Umwana kugira ubugingo muri we na we.

27Yamuhaye ububasha bwo guca imanza, kuko ari Umwana w'umuntu.

28Ntimutangazwe n'ico; kuko igihe kija kuza, aho abari mu mva bose bazokwumvira ijwi ryiwe,

29bakazivamwo; abakoze ivyiza bakazukira ubugingo, abakoze ibibi bakazukira gutsindwa n'urubanza.

© 2007 Bible Society of Burundi.

30Nta co nshobora gukora nigeneye; uko numvise ni ko nca urubanza, kandi urubanza nca rurabereye, kuko ntarondera ivyo nigombera, ariko ndondera ivyo uwantumye agomba.

31Asangwa nishingira intahe, intahe yanje ntizoba ari iyo ukuri;

32ariko hari Uwundi anshingira intahe, nanje nzi yuko intahe yiwe anshingira ari iyo ukuri.

33Mwebwe mwatumye kuri Yohana, ashingira ukuri intahe,

34mugabo jewe sindinda gushingirwa intahe n'umuntu; ariko ico mvugiye ivyo ni ukugira ngo mukizwe.

35Uwo yari itara ryaka rikabonesha, kandi namwe mwamaze igihe muhimbawe n'ukwaka kwiwe.

36Ariko jewe mfise ikinshingira intahe kuruta Yohana, kuko ibikorwa Data yampaye ngo ndabiheraheze, ivyo bikorwa nyene nkora ni vyo binshingira intahe yuko Data ari we yantumye.

37Kandi Data yantumye ni we anshingira intahe. Nta ho murumva ijwi ryiwe, kandi ntimurabona ishusho yiwe,

38bitayeko ntimufise ijambo ryiwe riguma muri mwebwe, kuko uwo yatumye mutamwizeye.

39Mwebwe murasoma mwitonze mu vyanditswe, kuko mugira ngo muri vyo ni ho mufise ubugingo budashira, kandi ari vyo binshingira intahe,

40ariko mukanka kuza kuri jewe ngo muronke ubugingo.

41Singomba gushimwa n'abantu,

42ariko mwebwe ndabazi yuko mutagira urukundo rw'Imana mu mitima yanyu.

43Jewe naje mw'izina rya Data, ntimwanyakira, ni hagira uwundi aza mw'izina ryiwe ubwiwe, we muzomwakira.

44Mwoshobora kwizera mute, ari mwebwe mwubahana, ariko icubahiro kiva ku Mana imwe nsa mutakirondera?

45Ntimugire ngo nzobarega kuri Data; hariho uwubarega, ni Mose uwo mwishimiye.

46Iyo mwizera Mose, nanje muba munyizeye, kuko ari ivyanje yanditse.

47Ariko ni mutizera ivyo uwo yanditse, amajambo yanje muzoyizera mute?

## Yohana 6

1Hanyuma y'ivyo Yesu avayo, yigira hakurya y'ikiyaga c'i Galilaya citwa Tiberiya.

2Ishengero ryinshi riramukurikira kuko ribonye ibimenyetso akora ku barwaye.

© 2007 Bible Society of Burundi.

3Yesu aduga umusozi, yicaranayo n'abigishwa biwe.

4Kandi imisi mikuru ya Pasika y'Abayuda yari hafi.

5Yesu yunamutse, abona ishengero ryinshi riza kuri we, abaza Filipo ati: "Tugurira
hehe imitsima, ngo barye bose?”

6Icatumye avuga atyo kwari ukumugeza, kuko ubwiwe yari azi ico agira akore.

7Filipo aramwishura ati: "Imitsima y'idenariyo amajana abiri ntiyobakwira, naho
umuntu wese yohabwa gatoya.”

8Umwe mu bigishwa biwe, ni Andereya mwene nyina wa Simoni Petero, aramubwira

9ati: "Hano hari umuhungu ari n'udutsima dutanu twa sayiri, n'udufi tubiri, ariko
tumaze iki mu bantu bangana uko?”

10Yesu aravuga ati: "Ni mwicarike abantu." Kandi aho hantu hari ivyatsi vyinshi;
nuko abantu baricara, igitigiri cabo cari nk'ibihumbi bitanu.

11Maze Yesu yakira ya mitsima, arayihezagira, ayigaburira abicaye, n'ifi na zo nk'uko
bagomba.

12Bamaze guhaga, abwira abigishwa biwe ati: "Ni mwegeranye utumanyagu
tw'imisigazwa, ntihagire igipfa ubusa.”

13Baratwegeranya, buzuza ibiseke icumi na bibiri vy'utumanyagu twa ya mitsima
itanu ya sayiri, utwo abariye bashigaje.

14Bano bantu babonye ikimenyetso akoze, baravuga bati: "Ni ukuri uwu ni wa muntu
avugishwa n'Imana yari akwiye kuza mw'isi.”

15Yesu amenye ko bagira baze kumufata ngo bamwimike, asubira ku musozi ari
wenyene gusa.

16Buhwibiriye, abigishwa biwe bamanuka ku kiyaga,

17batambukira mu bwato, bajabuka baja hakurya y'ikiyaga i Kaperinawumu.
Bwateranye Yesu atarabashikira;

18ikiyaga gitangura kuzungazunga, kuko umuyaga mwinshi uhuhuta.

19Bamaze gusoza nka stadiyo mirongo ibiri na zitanu canke mirongo itatu, babona
Yesu agendesha amaguru hejuru ku kiyaga, ariko aregera ubwato, na bo baratinya.

20Maze arababwira ati: "Ni jewe, nta co mutinya." “

21Bumva bakunze kumushira mu bwato, buno nyene buca bushika i musozi aho baja.

22Bukeye bw'aho, rya shengero ryari rihagaze hakurya y'ikiyaga, rimenye ko ata
bundi bwato bwariho atari bumwe, kandi yuko na Yesu atajanye n'abigishwa biwe mu
bwato, ariko abigishwa biwe ni bo bari bijanye;

© 2007 Bible Society of Burundi.

23(mugabo hari amato ajabuka ava i Tiberiya, afata hafi ya ha hantu baririye imitsima ihezagiwe n'Umwami Yesu).

24Nuko iryo shengero ribonye ko Yesu atari ho ari, n'abigishwa biwe na bo ari uko, rija muri ubwo bwato na bwo, rijabuka i Kaperinawumu rirondera Yesu.”

25Bamubonye hakurya y'ikiyaga baramubaza bati: "Mwigisha, waje ino ryari?”

26Yesu arabishura ati: "Ni ukuri ni ukuri ndababwire. Ntimundondera kuko mwabonye ibimenyetso, ariko ni uko mwariye kuri ya mitsima, mugahaga.

27Ntimukorere ivyo kurya biyoka, ariko mukorere ivyo kurya bihoraho bizana ubugingo budashira, ni vyo Umwana w'umuntu azobaha, kuko ari we Imana Data yashizeko ikimenyetso.

28Baramubaza bati: "Tugire dute ngo dukore ibikorwa vy'Imana?”

29Yesu na we arabishura ati: "Igikorwa c'Imana ngiki: ni uko mwizera uwo yatumye.”

30Nuko baramubaza bati: "None ukora ikimenyetso ki, ngo tukirabe tukwizere? Ukora ikimeze gite?

31Ba sogokuruza bacu barira manu mu bugaragwa, nk'uko vyanditswe ngo Yabahaye umutsima wo kurya uvuye mw'ijuru.”

32Yesu arababwira ati: "Ni ukuri ni ukuri ndababwire; Si Mose yabahaye umutsima uvuye mw'ijuru; Data ni we abaha umutsima w'ukuri uvuye mw'ijuru.

33Kuko umutsima w'Imana ari uwumanuka uva mw'ijuru, ugaha abari mw'isi ubugingo.

34Baramubwira bati: "Mugenzi, na ntaryo uzohore uduha uwo mutsima.”

35Yesu arababwira ati: "Ni jewe mutsima w'ubugingo, uwuza kuri jewe ntazosonza na mba, kandi uwunyizera nta ho azogira inyota na mba.

36Ariko narababwiye yuko mwambonye, muraheza ntimwizera.

37Ico Data ampa cose kiranshikira, kandi uwoza kuri jewe sinomuhinda na gatoya.

38Kuko ntakuwe mw'ijuru no gukora ivyo nigombera, ariko nazanywe no gukora ivyo uwantumye agomba.

39Kandi ico uwantumye agomba ngiki; agomba yuko mu vyo yampaye vyose hatagira na kimwe kinzimirana, ariko ngo nzokizure ku musi w'iherezo.

40Kuko iki ari co Data agomba, agomba yuko uwubona Umwana wese akamwizera, agira ubugingo budashira, nanje nkazomuzura ku musi w'iherezo.

41Buno Abayuda baramwidodombera, kuko yavuze ati: "Ni jewe mutsima wamanutse uva mw'ijuru.”

42Bati: "Uwu si we Yesu umwana wa Yosefu? Na se na nyina turabazi; none avuga ate ngo Namanutse mva mw'ijuru?”

© 2007 Bible Society of Burundi.

43 Yesu arabishura ati: "Nta co mugira imyidodombo muri mwebwe.

44 Nta n'umwe ashobora kuza kuri jewe Data yantumye atamukwegakweze; nanje nzomuzura ku musi w'iherezo.”

45 Mu majambo y'abavugishwa n'Imana handitswe ko bose bazoba abigishijwe n'Imana. Uwumvise ivya Data wese akavyiga, aza kuri jewe.

46 Si ukugira ngo hari uwabonye Data, atari uwavuye ku Mana: uwo ni we yabonye Data.

47 Ni ukuri ndakubwire koko; Uwizera afise ubugingo budashira.

48 Ni jewe mutsima w'ubugingo.

49 Ba sogokuruza banyu barira manu mu bugaragwa, barapfa,

50 uwu ni wo mutsima umanuka uva mw'ijuru, ngo umuntu awuryako ntapfe.

51 Ni jewe mutsima w'ubugingo wamanutse uvuye mw'ijuru; ni hagira uwurya kuri uwo mutsima azohoraho ibihe bidashira, kandi umutsima nzobaha n'umubiri wanje, utangirwa abari mw'isi ngo bagire ubugingo.

52 Abayuda batanako ibirake bati: "Uwu ashobora ate kuduha umubiri wiwe ngo tuwurye?”

53 Yesu arababwira ati: "Ni ukuri ni ukuri ndababwire; Ni mutarya umubiri w'Umwana w'umuntu, ngo munywe amaraso yiwe, nta bugingo mwogira muri mwebwe.”

54 Uwurya umubiri wanje akanywa amaraso yanje, ni we afise ubugingo budashira, nanje nzomuzura ku musi w'iherezo.

55 Kuko umubiri wanje ari ico kurya c'ukuri, n'amaraso yanje ari ico kunywa c'ukuri.

56 Uwurya umubiri wanje akanywa amaraso yanje, aguma muri jewe, nanje nkaguma muri we.

57 Nk'uko Data w'ubugingo yantumye, nanje ndiho kubwa Data, ni ko uwundya na we azobaho kubwanje.

58 Uwo ni wo mutsima wamanutse uvuye mw'ijuru, si nk'uwo ba sogokuruza banyu bariye, ariko bagapfa; uwurya uwo mutsima azohoraho ibihe bidashira.

59 Ivyo yabivugiye mu rusengero rw'Abayuda yigisha i Kaperinawumu.

60 Nuko benshi mu bigishwa biwe bavyumvise, baravuga bati: "Iryo jambo riragoye, hari uworyumva akarishobora?”

61 Yesu amenye mu mutima ko abigishwa biwe bidodombera ivyo, arababaza ati: "Mbega ivyo birabatsitaje?”

62 None bizomera bite ni mwabona Umwana w'umuntu aduga aja iyo yahora ubwa mbere?

© 2007 Bible Society of Burundi.

63Impwemu ni zo zitera ubugingo, umubiri nta co umaze; amajambo ndababwiye ni impwemu n'ubugingo.

64Ariko muri mwebwe hariho bamwe batizera. Kuko Yesu yahereye ubwa mbere azi abatizera abo ari bo, n'uwuzomugura uwo ari we.

65Kandi aravuga ati: "Ni co catumye ndababwira ko ata wushobora kuza kuri jewe atabihawe na Data.”

66Kuva ico gihe benshi mu bigishwa biwe bamuva inyuma, ntibaba bakijana na we.

67Yesu abaza bamwe icumi na babiri ati: "Mbega namwe muragomba kwigira?”

68Simoni Petero aramwishura ati: "Tuje kwa nde ga Mwigisha? Ko ari wewe ufise amajambo y'ubugingo budashira,

69natwe twarizeye, tumenya yuko wewe uri Uwera w'Imana.”

70Yesu aramwishura ati: "Mbega si jewe nabatoranije uko muri icumi na babiri?"Ariko umwe muri mwebwe ni umwansi.”

71Yavuga Yuda Isikaryota, umwana wa Simoni, kuko ari we yagira azomugure, yari uwo muri bamwe icumi na babiri.

## Yohana 7

1Hanyuma y'ivyo Yesu agendagenda i Galilaya; ntiyashaka kugendagenda i Yudaya kuko Abayuda barondera ingene bomwica.

2Imisi mikuru y'Abayuda yitwa iyo Amahema yariko irashika.

3Nuko abavukanyi biwe baramubwira bati: "Ni uve ino, uje i Yudaya, abigishwa bawe na bo barabe ibikorwa ukora;

4kuko ata wogira ico akora mu mpisho, na we ngo arondere kumenyekana. Ko ukora ivyo, ni wiserure mu b'isi.”

5Kuko n'abavukanyi biwe na bo batamwizera.

6Maze Yesu arabishura ati: "Igihe canje ntikiragera, ariko igihe canyu co, cama kiriho.

7Abo isi ntibabanka, ariko jewe baranyanka, kuko ndabavugira ibikorwa vyabo ko ari bibi.

8Mwebwe ni muduge kumara iyo misi mikuru, ariko jeho sindayidugako, kuko igihe canje kitaragera.

9Ababwiye ivyo, aguma i Galilaya.

10Abavukanyi biwe bamaze kuduga i Yerusalemu kumara iyo misi mikuru, na we araduga, ntiyiyerekana, ariko agenda mu mpisho.

11Maze Abayuda bamurondera muri iyo misi mikuru bati: "Mbega wa wundi ari hehe?”

© 2007 Bible Society of Burundi.

12Haba ivyongoshwe vyinshi mw'ishengero bamuvuga, bamwe bati: "Ni umuntu mwiza," abandi bati: "'Oya, arazimiza abantu.'“

13Ariko nta n'umwe yamuvuze atobora, kuko batinya Abayuda.

14Ya misi mikuru igeze hagati, Yesu aduga mu rusengero, arigisha.

15Abayuda baratangara bati: "Mbega uwu yakuye ubwenge hehe, atigishijwe?”

16Maze Yesu arabishura ati: "Izi nyigisho zanje si izanje, ni izo uwantumye.

17Ni haba hari uwugomba gukora ivyo uwo akunda, azomenya izi nyigisho, ko zavuye ku Mana, canke ko ndabivuga ndavyigeneye.

18Uwuvuga ivyo yigeneye aba yironderera icubahiro; ariko uwurondera icubahiro c'uwamutumye, ni we w'ukuri, kandi nta kugabitanya kuba kuri muri we.

19Mbega Mose si we yabahaye ivyagezwe? Ariko muri mwebwe nta n'umwe yitondera ivyo vyagezwe. Muronderera iki kunyica?”

20Ishengero riramwishura riti: "Urimwo dayimoni! Ni nde ashaka kukwica?”

21Yesu arabishura ati: "Nakoze igikorwa kimwe, mwese muratangara.”

22Mose yabahaye guhimbura igikoba c'ubugabo mugabo ntikwavuye kuri Mose, ni kuri ba sogokuruza banyu kandi muhimbura igikoba c'ubugabo umuntu kw'isabato.

23None se, ko umuntu ahimburwa igikoba c'ubugabo kw'isabato, kugira ngo icagezwe ca Mose ntimukirenge, none jewe mumpora iki ko kw'isabato nakijije umuntu akwiye?

24Ntimupfe guca imanza ku biboneka, ariko muce imanza z'ukuri.

25Bamwe mu b'i Yerusalemu baravuga bati: "Mbega uwo Si we bashaka kwica?”

26Ehe avuga akarararamango, nta co baruha bamubwira. Mbega harya abakuru bemeye vy'ukuri ko uyo ari we Kristo?

27Uwo ko tuzi aho yaturutse, ariko Kristo aho azozira, nta wuzi aho azoturuka.

28Nuko Yesu arasemerera yigisha mu rusengero ati: "Jewe muranzi, n'aho naturutse murahazi, kandi sinaje nitumye, ariko uwantumye n'uwo ukuri, mwebwe ntimumuzi;

29jeho ndamuzi, kuko navuye kuri we, kandi ari we yantumye.”

30Buno barondera ingene bomufata, ariko ntihagira uwumukozako n'intoke, kuko igihe ciwe kitaribwagere.

31Benshi mw'ishengero baramwizera baravuga bati: "Kristo ni yaza, mugira ngo azokora ibitangaza vyinshi birengeye ivyo uwu akora?”

32Abafarisayo bumvise ko ishengero rimuvugavuganako ivyo mu twongoshwe, abaherezi bakuru n'Abafarisayo batuma abagendanyi kumufata.

© 2007 Bible Society of Burundi.

33 Maze Yesu aravuga ati: "Hasigaye igihe gito nkiri kumwe namwe, hanyuma nkaja ku wantumye.

34 Muzondondera, ariko ntimuzombona, kandi iyo nzoba ndi ntimuzoshobora gushikayo.”

35 Maze Abayuda baravugana bati: "Mbega uwo agira aje hehe, aho twebwe tutazoshobora kumubona? Agira aje mu basabagiriye mu Bagiriki, ngo azokwigishe Abagiriki?

36 Mbega iryo jambo atubwiye ni iriki, ngo Muzondondera, ariko ntimuzombona, kandi ngo iyo nzoba ndi mwebwe ntimuzoshobora gushikayo?”

37 Nuko ku musi uherukira ya misi mikuru, ni wo musi uruta iyindi, Yesu arahagarara, arasemerera ati: "Namba hari uwufise inyota, ni aze kuri jewe, anywe.

38 Uwunyizera, inzuzi z'amazi y'ubugingo zizotemba ziva mu nda yiwe, nk'uko ivyanditswe bivuga.”

39 Ariko ivyo yabivuze kuri Mpwemu, uwo abamwizera bagira bahabwe; kuko Mpwemu ataribwatangwe, kuko Yesu ataribwashike mu bwiza bwiwe.

40 Bamwe mw'ishengero bumvise ayo majambo bati: "Ni ukuri uwu ni wa muntu avugishwa n'Imana.”

41 Abandi bati: "Uwu ni we Kristo. Abandi bati: "Oya, mbega Kristo yova i Galilaya?

42 Mbega icanditswe ntikivuga ko Kristo azova mu ruvyaro rwa Dawidi, i Betelehemu, wa musozi Dawidi yabako?”

43 Ishengero riramupfa,

44 bamwe muri bo bashaka kumufata, ariko ntihagira n'umwe amukozako n'intoke.

45 Nuko ba bagendanyi basubira ku baherezi bakuru n'Abafarisayo, na bo barababaza bati: "Ko mutamuzanye?”

46 Abagendanyi barabishura bati: "Erega ntihigeze kuboneka umuntu avuga nka we.”

47 Abafarisayo barababaza bati: "Mbega namwe mwajimijwe?

48 Hari umukuru n'umwe yamwizeye, canke Umufarisayo?”

49 Ariko abo bantu batazi ivyagezwe ni ibivume.

50 Nikodemu, umwe yaza kuri we mbere, yari umwe muri bo, arababaza

51 ati: "Mbega ivyagezwe vyacu biratsindisha umuntu batabanje kumwumva no kumenya ico yakoze?”

52 Baramwishura bati: "Mbega nawe uri uwo i Galilaya? Soma witonze urabe yuko hari uwuvugishwa n'Imana yova i Galilaya."

[ 53 Bose baca baritahira.

© 2007 Bible Society of Burundi.

## Yohana 8

1 Yesu aja ku musozi wa Elayono.

2 Mu gaturuturu asubira mu rusengero, abantu bose baza aho ari, aricara arabigisha.

3 Abahinga b'ivyanditswe bo n'Abafarisayo bamuzanira umugore, afashwe asambana, bamushira hagati,

4 baramubwira bati: "Mwigisha, uwu mugore bamuturumbukiyeko ariko arasambana.

5 Kandi Mose mu vyagezwe yatugeze kwicisha amabuye bene abo. None weho uvuga iki?"

6 Ariko ivyo babivuga ari ukumugeza, ngo bamukureko urwitwazo rwo kumurega. Ariko Yesu arunama, yandikisha urutoke hasi.

7 Maze bakobeje kumubaza, arunamuka, arababwira ati: "Uwutagira icaha muri mwebwe ni abe ari we abanza kumutera ibuye."

8 Asubira kwunama yandika hasi.

9 Na bo bavyumvise basohoka isorosoro, uhereye k'uwukuze ugashitsa ku muto, Yesu asigara wenyene, bo na wa mugore yari ahagaze hagati.

10 Yesu yunamutse aramubaza ati: "Yewe mugore, bamwe bakureze bari hehe? Nta n'umwe aguciriye urubanza?"

11 Na we ati: "Nta n'umwe, Mugenzi." Yesu aramubwira ati: "Nanje singucira urubanza." Ni wigire, guhera ubu ntuzosubire gukora icaha. ]

12 Yesu yongera kubabwira ati: "Jewe ndi umuco w'isi, uwunkurikira nta ho azogenda mu mwiza, ariko azogira umuco w'ubugingo."

13 Abafarisayo baramubwira bati: "Erega urishingira intahe, intahe yawe si iyo ukuri."

14 Yesu arabishura ati: "Naho jewe nishingira intahe, intahe yanje ni iyo ukuri, kuko nzi iyo navuye, n'iyo nja, ariko mweho ntimuzi iyo navuye canke iyo nja.

15 Mwebwe muca urubanza nk'abantu, jeho nta n'umwe ncira urubanza.

16 Kandi naho jewe noca urubanza, urubanza rwanje rwoba urwo ukuri, kuko ntari jenyene, ndi kumwe na Data yantumye.

17 Kandi no mu vyagezwe vyanyu handitswe ko intahe ishinzwe n'abantu babiri ari iyo ukuri.

18 Jewe ndi uwishingira intahe, kandi na Data yantumye aranshingira intahe na we."

19 Na bo baramubaza bati: "So ari hehe?" Yesu arabishura ati: "Nta jewe, nta Data, nta we muzi; iyo muba munzi, na Data muba mumuzi."

20 Ayo majambo yayavugiye mw'iyakiriro ry'amashikanwa, ariko arigisha mu rusengero; kandi nta n'umwe yamufashe, kuko igihe ciwe kitaribwashike.

© 2007 Bible Society of Burundi.

21 Nuko yongera kubabwira ati: "Jewe ndi mu kuhava, namwe muzondondera, kandi muzopfira mu vyaha vyanyu; jewe iyo nja mwebwe ntimuzoshobora gushikayo.”

22 Abayuda barabazanya bati: "Mbega azokwiyahura, ko agize ngo iyo aja ntituzoshobora gushikayo?”

23 Na we arababwira ati: "Mwebwe mwamutse hasi, jeho namutse iyo hejuru; mwebwe muri abo iyi si, jeho sindi uwo iyi Si.

24 Ico ni co gitumye ndababwira ko muzopfira mu vyaha vyanyu; kuko ni mutizera ko ndi We, muzopfira mu vyaha vyanyu.”

25 Nuko baramubaza bati: "Uri nde, wewe?" Yesu arabishura ati: "Ndi ico nababwiye uhereye ubwa mbere.

26 Ndafise ivyo kubabarira vyinshi, no kubacira urubanza. Kandi uwantumye ni uwo ukuri; ivyo namwumvanye ni vyo mvuga mw'isi.”

27 Ariko bo ntibamenya yuko ababwiye Se.

28 Nuko Yesu arababwira ati: "Aho muzomanikira Umwana w'umuntu, ni ho muzomenya ko ndi We, kandi ko ata co nkora nigeneye; uko Data yanyigishije, ni ko ndabivuga.

29 Kandi uwantumye turi kumwe na we, ntiyansize jenyene, kuko jewe na ntaryo nama nkora ibimuhimbara.”

30 Avuze ivyo, benshi baramwizera.

31 Nuko Yesu abwira Abayuda bari bamwemeye ati: "Ni mwaguma mw'ijambo ryanje, muri abigishwa banje vy'ukuri;

32 kandi muzomenya ukuri, kandi ukuri kuzobaha kwidegemvya.”

33 Baramwishura bati: "Turi uruvyaro rwa Aburahamu, nta ho twigeze kujakarira umuntu n'umwe; none uvuga ute ngo tuzohabwa kwidegemvya?”

34 Yesu arabishura ati: "Ni ukuri ni ukuri ndababwire, uwukora icaha wese ni umuja w'icaha.

35 Umushumba ntiyama ahangamye mu muryango, ariko umwana we yama ahangamye.

36 Umwana ni yabaha kwidegemvya, muzoba abidegemvya nyakuri.

37 Ndazi ko muri uruvyaro rwa Aburahamu, yamara murondera ingene mwonyica, kuko ijambo ryanje ritagira ikibanza muri mwebwe.

38 Jewe mvuga ivyo nabonye kuri Data; namwe mukora ivyo mwumvise kuri so.”

39 Baramwishura bati: "Aburahamu ni we data." Yesu arabishura ati: "Iyo muba mu bana ba Aburahamu, muba mukora ibikorwa nk'ivya Aburahamu.

© 2007 Bible Society of Burundi.

40Ariko none murondera ingene mwonyica, umuntu yababariye ivyo ukuri, ivyo numvise ku Mana; Aburahamu ntiyagize atyo.

41Mukora ibikorwa nk'ivya so. Baramubwira bati: "Twebwe ntituri ibivyarwa, dufise Data umwe, ni Imana."

42Yesu arababwira ati: "Iyo Imana iba ari So, muba munkunda, kuko jewe naje mvuye ku Mana; sinaje nitumye, ariko ni yo yantumye.

43Ni igiki gituma mutamenya imvugo yanje? Ni uko mudashobora kwumva ijambo ryanje.

44Mwebwe muri aba so wa mugarariji, kandi ivyo so yifuza ni vyo mushaka gukora. Uwo yahereye mu ntango ari umwicanyi, kandi ntiyahagaze mu kuri, kuko ata kuri kuri muri we. Iyo avuga ibinyoma, avuga ivyiwe, kuko ari umunyabinyoma, kandi ari we se wavyo.

45Ariko jeho, kuko mvuga ivyo ukuri, ntimunyemera.

46Ni nde muri mwebwe yonyagiriza icaha nakoze? Ko mvuga ukuri, ni igiki gituma mutanyemera?

47Uwo Imana yumva amajambo y'Imana; mwebwe igituma mutumva, ni uko mutari abo Imana."

48Abayuda baramwishura bati: "None se ntitwavuze ukuri ko uri Umusamariya, kandi ko urimwo dayimoni?"

49Yesu arabishura ati: "Jewe sindimwo dayimoni, ariko nubaha Data, namwe ntimunyubaha.

50Jewe sinironderera icubahiro, hariho uwukindonderera, kandi ni we Gahinyuza.

51Ni ukuri ndakubwire koko, ni hagira uwitondera ijambo ryanje, ntazobona urupfu gushitsa ibihe bidashira."

52Abayuda baramubwira bati: "Noneho turamenye ko urimwo dayimoni." Aburahamu yarapfuye, n'abavugishwa n' Imana ni uko, ariko wewe uvuze uti: "Ni hagira uwitondera ijambo ryanje, nta ho azokwumviriza ku rupfu."

53Mbega uruta sogokuruza wacu Aburahamu? We ko yapfuye, n'abavugishwa ni Imana na bo bakaba barapfuye, wiyita nde?"

54Yesu arabishura ati: "Ni naba niha icubahiro, icubahiro canje kizoba ari ico ubusa; uwumpa icubahiro ni Data, uwo muvuga ngo n'Imana yanyu,

55yamara ntimumuzi, ariko jewe ndamuzi. Kandi ni navuga ngo sindamuzi, nzoba mbaye umunyabinyoma nkamwe; ariko ndamuzi, kandi nitondera ijambo ryiwe."

56Aburahamu sogokuruza wanyu yari yarahahamiye kubona umusi wanje, kandi yarawubonye, aranezerwa."

© 2007 Bible Society of Burundi.

57Nuko rero Abayuda baramubwira bati: "Ube utaramara imyaka mirongo itanu, ngo warabonye Aburahamu?"

58Yesu arababwira ati: "Ni ukuri ni ukuri ndababwire, Aburahamu ataravuka, jewe namye ndiho."

59Baca batora amabuye yo kumutera, maze Yesu arihisha, ava mu rusengero.

## Yohana 9

1Ariko arahita, abona umuntu yavutse ari impumyi.

2Abigishwa biwe baramubaza bati: "Mwigisha, ni nde yakoze icaha, ni uwo, canke ni abavyeyi biwe, ko yavutse ari impumyi?"

3Yesu arabishura ati: "Uwu ntiyakoze icaha, kandi si abavyeyi biwe, ariko ni ukugira ngo ibikorwa vy'Imana bibonekere kuri we."

4Twebwe dukwiye gukora ibikorwa vy'uwantumye hakibona; buhava bwira, ata wugishobora gukora.

5Nkiri mw'isi, ndi umuco w'isi."

6Avuze ivyo, acira amate hasi, avurungisha amate utwondo, araheza amusiga utwo twondo ku maso;

7aramubarira ati: "Genda wiyuhagire mu kidengeri Silowamu; (Silowamu risobanurwa ngo Mutumwa). Nuko aragenda ariyuhagira, agaruka abona.

8Nuko ababanyi biwe, n'abahora bamubona ko ari umusezi, barabazanya bati: "Mbega uwu si we yahora yicaye asegerereza?"

9Abandi bati: "Ni we;" abandi bati: "Oya, ni uwo basa." Na we arababwira ati: "Ni jewe."

10Nuko baramubaza bati: "Mbega none amaso yawe yahumutse ate?"

11Na we arabishura ati: "Wa muntu yitwa Yesu yavurunze utwondo, atunsiga ku maso, arambwira ko nja kuri Silowamu kwiyuhagira; nuko ndagenda, ndiyuhagira, ndahumuka."

12Baramubaza bati: "Ari hehe?" Ati: "Sindahazi."

13Umwe yahora ari impumyi bamujana ku Bafarisayo.

14Kandi uwo musi wari isabato, Yesu yavurunzeko utwondo, agahumura amaso yiwe.

15Abafarisayo basubira kumubaza ingene yahumutse, na we arababwira ati: "Yansize utwondo ku maso, ndiyuhagira, ndahumuka."

16Bamwe mu Bafarisayo baravuga bati: "Uwo muntu ntava ku Mana, kuko atazigiriza isabato." Abandi bati: "Mbega umuntu w'umunyavyaha yoshobora ate gukora ibimenyetso bingana bityo?" Baramupfa.

© 2007 Bible Society of Burundi.

17Basubira kubaza umwe yahora ari impumyi bati: "Weho uvuga ko ari iki, kuko yaguhumuye amaso?" Na we ati: "Ni uwuvugishwa n'Imana."

18Maze Abayuda ntibemera ivyo uwo, yuko yamye ari impumyi, agaheza agahumuka, kugeza aho bahamagariye abavyeyi b'uwahumutse,

19barababaza bati: "Mbega uwu ni umwana wanyu, mwebwe muvuga ko yavutse ari impumyi? None yahumutse ate?"

20Abavyeyi biwe barabishura bati: "Uwu turazi ko ari umwana wacu, kandi ko yavutse ari impumyi;

21ariko icatumye abona ubu, ntitukizi, kandi n'uwamuhumuye, tweho ntitumuzi. Mumwibarize, ni umugabo, arivugira."

22Abavyeyi biwe bavugiye ivyo, kuko batinya Abayuda, kuko Abayuda bari bamaze kuja ingingo, ngo umuntu wese azokwatura Yesu ko ari Kristo acibwe mu rusengero rwabo.

23Ni co catumye abavyeyi biwe bavuga bati: "Ni umugabo, ni mumwibarize."

24Maze bahamagara ubugira kabiri wa muntu yahora ari impumyi, baramubwira bati: "Ni wubahe Imana, twebwe tuzi yuko uwo muntu ari umunyavyaha."

25Na we arabishura ati: "Namba ari umunyavyaha sindabizi: ico nzi ni kimwe, ni uko nari impumyi, none nkaba mbona."

26Baramubaza bati: "Yakugiriye ate? Yahumuye amaso yawe ate?"

27Arabishura ati: "Namaze kubibabwira ariko ntimwavyumvise. Mugombera iki gusubira kuvyumva? Mbega namwe mugomba kuba abigishwa biwe?"

28Baramutuka bati: "Ni wewe wenyene uri umwigishwa wiwe, nayo tweho turi abigishwa ba Mose.

29Twebwe tuzi yuko Imana yavuganye na Mose, ariko uwo ntituzi aho aturuka."

30Wa muntu arabishura ati: "Erega biratangaje kwumva ko mutazi aho aturuka, kandi ari we yahumuye amaso yanje.

31Turazi ko Imana itumviriza abanyavyaha, ariko uwuyubaha, agakora ivyo igomba, uwo ni we yumviriza.

32Uhereye kera hose ntihumvikanye ko hari umuntu yahumuye amaso y'uwavutse ari impumyi.

33Iyaba uwo atavuye ku Mana, nta co yoshoboye gukora."

34Baramwishura bati: "Wewe wavukiye mu vyaha gusa gusa, ni wewe utwigisha?" Bamuhindira hanze.

35Yesu yumvise ko bamuhindiye hanze, aja kumuraba, aramubaza ati: "Mbega wizeye Umwana w'Imana?"

© 2007 Bible Society of Burundi.

36Na we aramwishura ati: "Ni nde ga Mugenzi, nkamwizera?”

37Yesu aramubwira ati: "Wamubonye, kandi ni we muriko muravugana.”

38Na we ati: "Ndizeye, Mwami." Araheza aramupfukamira.

39Yesu aravuga ati: "Naje muri iyi si kuba agahinyuza, ngo abatabona babone,
n'ababona babe impumyi.”

40Bamwe mu Bafarisayo bari kumwe na we bumvise ivyo bati: "Mbega natwe turi
impumyi?”

41Yesu arababwira ati: "Iyo muba mwari impumyi, nta caha muba mufise, ariko
noneho muvuga muti: 'Turabona, icaha canyu camaho."

## Yohana 10

1Ni ukuri ni ukuri ndababwire, uwudaca mw'irembo ry'urugo rw'intama, ariko
akuririra ahandi, uwo aba ari igisuma n'umwambuzi.

2Ariko uwuca mw'irembo ni we mwungere w'intama.

3Umurarizi w'irembo aramwugururira, kandi intama zumva ijwi ryiwe; ahamagara
intama ziwe mu mazina yazo, akaziturutsa.

4Kandi iyo amaze guturutsa iziwe zose, azija imbere, zikamukurikira kuko zizi ijwi
ryiwe.

5Ariko uwo zitazi ntizomukurikira na mba, zomuhunga, kuko zitazi amajwi y'abandi.

6Yesu abacira uwo mugani, ariko bo ntibatahura ivyo ababwira ivyo ari vyo.

7Nuko Yesu yongera kubabwira ati: "Ni ukuri ni ukuri ndababwire, ni jewe rembo
ry'intama.”

8Abanyitangiye imbere bose bari ibisuma n'abambuzi, ariko intama ntizabumviye.

9Ni jewe rembo, kandi uwushika mu rugo wese aciye muri jewe arakizwa; agataha,
agaturuka, akaronka ubwatsi butotahaye.

10Igisuma ntikizanwa n'ikindi, atari ukwiba, ukwica n'ugutikiza; nayo jeho nazanywe
no kugira ngo zironke ubugingo, kandi ngo ziburonke busagutse.

11Ni jewe mwungere mwiza; umwungere mwiza yigura intama ziwe.

12Ariko umucangero, atari umwungere bwite, n'intama ntizibe iziwe, iyo abonye
ibingira rije, ata intama, agahunga, ibingira rikazisahura, rikazishwiragiza.

13Arahunga, kuko ari umucangero, atababaye intama.

14Ni jewe mwungere mwiza, ndazi izanje, n'izanje ziranzi,

15nk'uko Data anzi, nanje nkamumenya; kandi ndigura intama zanje.

© 2007 Bible Society of Burundi.

16Kandi mfise n'izindi ntama zitari izo muri uru rugo, na zo nyene birankwiye kuzija imbere, zizokwumva ijwi ryanje, hazoba umukuku umwe n'umwungere umwe.

17Igituma Data ankunda, ni uko ndekura ubugingo bwanje, ngo mpeze nsubire kubwakira.

18Nta n'umwe abunyaka, kuko ndaburekura kubwanje; mfise ububasha bwo kuburekura, mfise n'ububasha bwo gusubira kubwakira. Ico ni co cagezwe nahawe na Data."

19Abayuda bongera kumupfa kubwo ayo majambo,

20benshi muri bo bati: "Arimwo dayimoni, kandi yasaze; mumwumviririza iki?"

21Abandi bati: "Erega ayo majambo si nk' ayo uwuhagazweko na dayimoni; mbega dayimoni arashobora guhumura amaso y'impumyi?"

22Maze haza imisi mikuru yo kwibuka uguhumanurwa kw'urusengero i Yerusalemu, hari mu rushana.

23Yesu agendagenda mu rusengero mw'ibaraza rya Salomo.

24Abayuda baramukikiza, baramubaza bati: "Mbega uzotujuragiza kugeza ryari?" Asangwa uri Kristo bidufoborere.

25Yesu arabishura ati: "Narababwiye, ariko ntimwizera. Ibikorwa nkora mw'izina rya Data, ni vyo binshingira intahe.

26Ariko ntimwizera, kuko mutari abo mu ntama zanje.

27Ababaye intama zanje bumva ijwi ryanje, nanje ndabazi, na bo barankurikira,

28kandi nanje ndabaha ubugingo budashira, nta ho bazokwigera bapfa rubi gushitsa ibihe bidashira, kandi nta wushobora kubanshikura mu kuboko kwanje.

29Data yabampaye ni we aruta bose; nta wushobora kubashikura mu kuboko kwa Data.

30Jewe na Data turi umwe."

31Buno Abayuda bongera gutora amabuye, ngo bayamutere.

32Yesu arababwira ati: "Naberetse ibikorwa vyiza vyinshi bivuye kuri Data, ikibatuma kuntera amabuye muri ivyo bikorwa ni ikihe?"

33Abayuda baramwishura bati: "Ntituguterera amabuye ku bwo igikorwa ciza, ariko ni kuko watyojeje Imana; kuko wewe uri umuntu ukigira Imana."

34Yesu arabishura ati: "Mbega ntihanditswe mu vyagezwe vyanyu, ko navuze nko muri imana?"

35None ko yabise imana, bamwe ijambo ry'Imana ryashitseko (kandi ivyanditswe ntibishobora guhinduka),

© 2007 Bible Society of Burundi.

36mwebwe mubwira mute uwo Data yejeje, akamutuma mw'isi, ko atyojeje Imana, kuko navuze nti: "Ndi Umwana w' Imana?

37Asangwa ntakora ibikorwa vya Data, ntimunyemere;

38ariko ni nabikora, naho jewe mutanyemera, mupfe kwemera ibikorwa, kugira ngo mumenye, mutahure, yuko Data ari muri jewe, nanje nkaba muri Data.

39Nuko bongera kurondera ingene bomufata, abava mu maboko.

40Avayo, yongera kuja hakurya ya Yorodani, ha hantu Yohana yabatiriza ubwa mbere, agumayo.

41Benshi baza kuri we; baravuga bati: "Yohana nta kimenyetso yakoze, ariko ivyo Yohana yavuze vyose kuri uwo vyari ivyo ukuri."

42Kandi benshi bamwizererayo.

## Yohana 11

1Hariho uwari arwaye, ni Lazaro w'i Betaniya, ni wa musozi Mariya na mwene nyina Marita babako.

2Uwo Mariya ni we yasize Umwami Yesu amavuta amota cane ku birenge, amuhanaguza umushatsi wiwe; uwo Lazaro yari arwaye ni we musaza we.

3Bashiki biwe batuma kuri Yesu bati: "Mugenzi, wa wundi ukunda ararwaye."

4Yesu avyumvise aravuga ati: "Iyo ndwara si iyo kumwica, ariko ni iyo gutuma bashimagiza Imana, kugira ngo n'Umwana w'Imana itume ashemagizwa."

5Kandi Yesu yarakunda Marita na mwene nyina na Lazaro.

6Nuko yumvise ko arwaye, asibira aho hantu yari ari imisi ibiri.

7Hanyuma y'ivyo abwira abigishwa biwe ati: "Dusubire i Yudaya."

8Abigishwa baramubwira bati: "Mwigisha, Abayuda baheruka gushaka kugutera amabuye, none usubireyo?"

9Yesu arabishura ati: "None isaha z'umurango si icumi na zibiri? Uwugenda ku murango ntatsitara, kuko abona umuco w'iyi si.

10Ariko uwugenda mw'ijoro aratsitara, kuko umuco utari muri we."

11Amaze kuvuga ivyo, arababwira ati: "Lazaro, umukunzi wacu, arasinziriye, nanje ndagiye kumukangura."

12Nuko abigishwa baramubwira bati: "Mugenzi, asangwa asinziriye, azokira."

13Yamara Yesu yavuga ko yapfuye, ariko bo bagira ngo avuga kuruhuka kwo gusinzira.

14Buno Yesu avuga abifoboye ati: "Lazaro yahwereye;

© 2007 Bible Society of Burundi.

15ariko kubwanyu ndanezerewe ko ntariyo, kugira ngo muzokwizere; noneho ni muze tuje iyo ari.”

16Toma ari we Hasa abwira abigishwa bagenzi biwe ati: "Ingo tugende, dupfane na Yesu.”

17Nuko Yesu ashitse asanga amaze imisi ine mu mva.

18I Betaniya hari hafi y'i Yerusalemu nka stadiyo icumi na zitanu.

19Nuko Abayuda benshi bari baje kwa Marita na Mariya ku bagarukirako kuko musaza wabo yapfuye.

20Nuko Marita yumvise ko Yesu aje, aragenda aramusanganira; ariko Mariya asigara yicaye mu nzu.

21Marita abwira Yesu ati: "Mugenzi, iyo uba wari hano, musazanje ntaba yahwereye.”

22Kandi n'ubu ndazi ko ivyo wosaba Imana vyose, Imana yobiguha.

23Yesu aramubwira ati: "Musazawe azozuka.”

24Marita aramwishura ati: "Ndazi ko azozuka mw'izuka ryo ku musi w'iherezo.”

25Yesu aramubwira ati: "Ni jewe kuzuka n'ubugingo. Uwunyizera n'iyo yoba yarapfuye, azobaho;

26kandi uwuriho wese anyizera, nta ho azokwigera apfa gushitsa ibihe bidashira. Urizeye ivyo?”

27Na we ati: "Ego me Mugenzi, nizeye ko uri Kristo, Umwana w'Imana, umwe wo kuza mw'isi.”

28Avuze ivyo, asubira inyuma, yongorera Mariya, mwene nyina ati: "Umwigisha ari hano, araguhamagaje.”

29Na we avyumvise, ava hasi ningoga, aja aho ari.

30Yesu ntiyari bwashike muri iyo mihana, ariko yari akiri ha handi aho Marita yamusanganiriye.

31Buno Abayuda bari kumwe na Mariya mu nzu bamugandariye, babonye avuye hasi ningoga, asohotse, baramukurikira, bagira ngo agiye kuririra ku mva.

32Mariya ashitse aho Yesu ari, amubonye, yikubita imbere y'ibirenge vyiwe ati: "Mugenzi, iyo uba wari hano, musazanje ntaba yahwereye.”

33Yesu abonye ko arira, n'Abayuda bari kumwe na we barira, agira ikigumbagumba mu mutima, biranka,

34arababaza ati: "Mwamuhamvye hehe?" Bati: "Mugenzi, ngwino urabe.”

35Yesu ararira.

36Abayuda baravuga bati: "Ehe ingene yamukunda.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

37Ariko bamwe muri bo baravuga bati: "Mbega uwo yahumuye amaso y'impumyi, ntiyoshoboye kubuza uwo ngo ntapfe?”

38Yesu yongera kugira ikigumbagumba mu mutima, ashika ku mva; kandi yari isenga yugajwe ikibuye.

39Yesu aravuga ati: "Ni mukureho iryo buye." Marita mushiki w'uwapfuye, aramubwira ati: "Mugenzi, erega ubu aramaze kunuka, ko amaze imisi ine.”

40Yesu aramubwira ati: "Sinakubwiye ko ni wizera ubona ubwiza bw'Imana?”

41Nuko bakuraho ikibuye. Buno Yesu ararangamiza ati: "Data, ndagushima ko wanyumvirije.

42Jewe nari nsanzwe nzi ko unyumviriza ubudasiba, ariko ndabivugishijwe n'ishengero rihagaze ngaha, kugira ngo bizere ko ari wewe wantumye.”

43Amaze kuvuga ivyo, asemerera n'ijwi rirenga ati: "Lazaro, ngwino, sohoka.”

44Uwari yapfuye arasohoka, azingiriweko impuzu ku maguru no ku maboko, n'igitambara gipfutse mu maso hiwe. Yesu arababwira ati: "Ni mumuhamburure, mumureke, agende." “

45Nuko benshi muri abo Bayuda bari baje kwa Mariya, babonye ico Yesu akoze, baramwizera,

46ariko bamwe muri bo baja ku Bafarisayo, bababwira ivyo Yesu akoze.

47Nuko abaherezi bakuru n'Abafarisayo bakoranya inama nkuru y' abacamanza, barababaza bati: " "Mbega, tugire dute? Ko uwu muntu akora ibimenyetso vyinshi.

48Ni twamurekeraho dutyo, bose bazohava bamwizera, kandi Abaroma bazoza batikize igisagara cacu n'ubwoko bwacu.”

49Ariko umwe muri bo, ni Kayafa, yari umuherezi mukuru muri uwo mwaka, arababwira ati: "Mwebwe nta co muzi na mba,

50kandi nta co mwiyumvira yuko ari ibibereye kubwanyu ko umuntu umwe apfira abantu, hako ubwoko bwose buhona.”

51Ivyo ntiyabivuze avyigeneye, ariko, kuko yari umuherezi mukuru muri uwo mwaka, yavugishijwe ko Yesu agira apfire ubwo bwoko;

52kandi si ubwo bwoko bwonyene, ariko ngo abana b'Imana bose bari basanzaye, abakoranirize hamwe.

53Nuko bahera uwo musi baja inama yo kumwica.

54Maze Yesu ntiyaba akigenda yibonekeza mu Bayuda, ariko avayo, aja mu gihugu kiri hafi y'ubugaragwa mu gisagara citwa Efurayimu, agumanayo n'abigishwa.

55Maze Pasika y'Abayuda yariko irashika, benshi bava mu misozi, baduga i Yerusalemu ngo bihumanure, Pasika itarashika.

© 2007 Bible Society of Burundi.

56Maze barondera Yesu, babazanya bahagaze mu rusengero bati: "Mbega, mugira ngo iki? Ubwo ntazoza muri iyi misi mikuru?"

57Kandi abaherezi bakuru n'Abafarisayo bari bashinze ngo uwomenya aho ari aharange, ngo bamufate.

## Yohana 12

1Nuko hasigaye imisi itandatu Pasika igashika, Yesu aja i Betaniya, ni ho haba Lazaro yari yazuye mu bapfuye.

2Barahamuzimanira; Marita yarahereza, kandi na Lazaro yari umwe wo mu bicaranye na we basangira.

3Maze Mariya yakira ingero y'amavuta amota cane y'igiciro kinini cane, y'agati kitwa narada, ayasiga ku birenge vya Yesu, abihanaguza umushatsi wiwe, kandi inzu yose itamiranamwo ayo mavuta.

4Ariko Yuda Isikaryota, umwe mu bigishwa biwe, uwagira azomugure, aravuga

5ati: "Ni igiki catumye ayo mavuta ataguzwe idenariyo amajana atatu, ngo zihabwe aboro?"

6Ariko ivyo ntiyabivugishijwe no kubabara aboro, ni uko yari umwivyi, agendana umupfuko, agasotora ku bibitswemwo.

7Yesu aramubwira ati: "Ni umureke, kuko ivyo yabibikiye umusi wo guhambwa kwanje.

8Aboro muramana imisi yose, ariko jeho ntituja kwamana imisi yose." "

9Ishengero ryinshi ry'Abayuda rimenye ko ari ho ari, baraza, mugabo ntihari kubwa Yesu gusa, ariko kwari ukugira ngo barabe na Lazaro yazuye mu bapfuye.

10Ariko abaherezi bakuru baja inama yo kwica Lazaro na we,

11kuko kubwiwe Abayuda benshi babavako bakizera Yesu.

12Bukeye bw'aho, ishengero ryinshi ryari ryaje i Yerusalemu muri iyo misi mikuru, bumvise ko Yesu azayo,

13bakira amashami y'ibigazi, baja kumusanganira, barasemerera bati: " "Hoziyana; hashemezwe uwuje mw'izina ry'Uhoraho, ni we Mwami w'Abisirayeli."

14Kandi Yesu abonye inyana y'indogoba, ayicarako, nk'uko handitswe,

15ngo Nta co utinya, mukobwa w'i Siyoni, raba, Umwami wawe araje, ari ku nyana y'indogoba.

16Ivyo abigishwa ntibabitahuye ubwa mbere, ariko Yesu amaze guhabwa ubwiza bwiwe, ni ho bibutse ko ivyo yavyandikiwe, kandi ko ari vyo bamugiriye.

© 2007 Bible Society of Burundi.

17Nuko rya shengero rimushingira intahe, rimwe ryari kumwe na we hamwe yahamagara Lazaro ngo ave mu mva, akamuzura mu bapfuye.

18Kandi ni co catumye ishengero rimusanganira, kuko bumvise ko yakoze ico kimenyetso.

19Ariko Abafarisayo bavugana muri bo bati: "Murabona ko ata co mumaze, raba isi yose yamukondoreye inyuma."

20Hari Abagiriki bamwe, mu baduze gusenga mu misi mikuru,

21bashikira Filipo w'i Betsayida i Galilaya, baramwinginga bati: "Mugenzi, turagomba kuraba Yesu."

22Filipo araza abibarira Andereya; Andereya na Filipo baraza babibarira Yesu.

23Yesu arabishura ati: "Igihe kirageze c'uko Umwana w'umuntu ahabwa ubwiza bwiwe.

24Ni ukuri ni ukuri ndababwire; iyo agatete k'ingano kataguye mw'ivu ngo gapfe, kaguma uko kari konyene; ariko iyo gapfuye, gahunda impeke nyinshi.

25Uwukunda ubugingo bwiwe azobubura, ariko uwanka ubugingo bwiwe muri iyi si azobuzigama gushitsa ku bugingo budashira.

26Ni hagira uwunkorera, ni ankurikire, kandi aho nzoba ndi, umukozi wanje ni ho azoba, ni hagira uwunkorera, Data azomuha icubahiro.

27Umushaha wanje urahagaze; none mvuge iki? Ngire nti: "Data, ni unkize iki gihe? Yamara ni co canzanye ngo nshike muri iki gihe.

28Data, shimagiza izina ryawe." Maze ijwi riva mw'ijuru riti: "Ndarishimagije, kandi nzokwongera kurishimagiza."

29Ishengero rihagazeho rivyumvise riti: "Ni umuturagaro." Abandi bati: "Ni umumarayika avuganye na we."

30Yesu arabishura ati: "Iryo jwi ntirije kubwanje, ariko rije kubwanyu.

31None ubu iyi si iciriweko urubanza, none ubu umutware w'iyi si agira ahindirwe hanze.

32Nanje ni namanikwa hejuru y'isi, nzokwikwegerako bose."

33Avuga ivyo ari ukubamenyesha urupfu agira apfe.

34Ishengero riramwishura riti: "Twebwe twumvise mu vyagezwe ko Kristo azohoraho ibihe bidashira. None uvuze ute ngo Umwana w'umuntu akwiye kumanikwa? Mbega uwo Mwana w'umuntu ni nde?"

35Yesu arababwira ati: "Hasigaye igihe gito umuco ukiri muri mwebwe; ni mugende mugifise umuco, umwiza ntubiriranireko." Uwugenda mu mwiza ntamenya iyo aja.

© 2007 Bible Society of Burundi.

36Mugifise umuco, mwizere umuco, ngo mube abana b'umuco. " Yesu amaze kuvuga
ivyo, arigira, arabihisha.

37Ariko naho yakoreye ibimenyetso bingana uko imbere yabo, ntibarushe bamwizera,

38ngo ijambo ry'uwavugishwa n'Imana Yesaya rishike,ngo, Mwami, ni nde yizeye ico
twumvise?Kandi ukuboko kw'Uhoraho kwahishuriwe nde? “

39Ni co catumye badashobora kwizera, kuko Yesaya yongeye kuvuga

40ati: "Yabahumye amaso, yabakomantaje imitima,Kugira ngo ntibaboneshe amaso,
ngo batahurishe imitima,Bahindukire,Ngo ndabakize.”

41Ivyo Yesaya yabivuze, kuko yabonye ubwiza bwiwe, kandi ni we yavuzeko.

42Yamara no mu bakuru, benshi baramwizeye; ariko ku bwo Abafarisayo
ntibavyatura, kugira ngo ntibahimburwe igikoba c'ubugabo mu rusengero
rw'Abayuda,

43kuko bakunda icubahiro c'abantu kukirutisha icubahiro c' Imana.

44Yesu arasemerera ati: "Uwunyizera, si jewe yizeye, ariko yizeye uwantumye;

45uwumbonye aba abonye uwantumye.

46Naje mw'isi ndi umuco, kugira ngo uwunyizera wese ntazogume mu mwiza.

47Ariko ni hagira uwumva amajambo yanje, ntayazigame, si jewe ndamucira
urubanza; kuko ntazanywe no gucira urubanza isi, ariko nazanywe no gukiza isi.

48Ariko uwungaya, ntiyemere amajambo yanje, ari n'ikizomutsindisha, ijambo navuze
ni ryo rizomutsindisha ku musi w'umuhero.

49Kuko ivyo ntabivuze ndavyigeneye, ariko Data yantumye, ni we yangeze ivyo
nkwiye kuvuga n'ivyo nkwiye gusigura.

50Kandi ndazi yuko ivyo yageze ari ubugingo budashira. Nuko ivyo mvuga,
ndabivuga nk'uko Data yambariye."

## Yohana 13

1Umusi wa Pasika utarashika, Yesu amenye ko igihe ciwe gishitse co kuva mw'isi ngo
aje kwa Se, uko yakunda abiwe bari mw'isi, ni ko yabakunze gushitsa ku muhero.

2Bakiriko bararya ku mugoroba, wa mugarariji amaze kwinjiza ubuguranyi mu
mutima wa Yuda Isikaryota, umwana wa Simoni,

3Yesu yari azi ko Se yamuhaye vyose yabishize mu maboko yiwe, kandi ko yavuye
ku Mana, kandi ko agira asubire ku Mana,

4ava hasi mw'iriro, akura umutamana, yakira icambazo, arakenyera;

5araheza asuka amazi mu mubehe, atangura kwoza ibirenge vy'abigishwa, no
kubihanaguza icambazo akenyeje.

© 2007 Bible Society of Burundi.

6 Nuko ashika kuri Simoni Petero, na we aramubaza ati: "Mugenzi, ni wewe unyoza ibirenge?”

7 Yesu aramwishura ati: "Ico jewe ndiko ndakora, wewe nturibukimenye ubu; ariko uzokimenya hanyuma.”

8 Petero aramubwira ati: "Nta ho uzokwigera unyoza ibirenge gushitsa ibihe vyose." Yesu aramwishura ati: "Ni ntakwoza, nta ho tuzoba duhuriye.”

9 Simoni Petero aramubwira ati: "Mugenzi, ntugarukize ku birenge gusa, ariko ushikane ku maboko no ku mutwe.”

10 Yesu aramubwira ati: "Uwari yiyuhagiye nta kindi agomba, atari ukwoga ibirenge, kuko aba akeye umubiri wose, namwe murakeye, ariko si mwese." “

11 Kuko yari azi uwuzomugura uwo ari we; ni co catumye avuga ati: "Ntimukeye mwese.”

12 Nuko ahejeje kuboza ibirenge, yakira umutamana wiwe, yongera kwicara; arababaza ati: " "Mbega muramenye ico ndabagiriye?

13 Munyita Mwigisha na Shobuja, kandi mubivuga ko, kuko ari ko ndi.

14 Nuko rero, ko jewe ndabogeje ibirenge, ndi Shobuja n'Umwigisha, namwe mukwiye kwozanya ibirenge.

15 Kuko ndabahaye akarorero, kugira ngo nk'uko jewe ndabagiriye, mube ari ko namwe mugira.

16 Ni ukuri ni ukuri ndababwire, umushumba ntaruta shebuja, kandi n'intumwa ntiruta uwayitumye.

17 Ni mwamenya ivyo, muzoba muhiriwe ni mwabikora.

18 Simvuze mwese, kuko nzi abo natoranije, ariko ni ukugira ngo ivyanditswe bishike, ngo Uwurya ivyo kurya vyanje ni we ambanguriye umugere.

19 Uhereye ubu ndabibabariye bitaraba, kugira ngo aho bizobera, mwizere ko ndi we.

20 Ni ukuri ndababwire, uwakira uwo nzotuma azoba anyakiriye, uwunyakira aba yakiriye uwantumye.”

21 Yesu avuze ivyo, ahagarika umutima, abivuga avyataguye ati: "Ni ukuri ni ukuri ndababwire, umwe muri mwebwe agira angure.”

22 Abigishwa bararabana, bazazaniwe uwo avuze uwo ari we.

23 Hariho umwe mu bigishwa biwe yari yegamiye mu gikiriza ca Yesu bariko bararya, umwe Yesu yakunda.

24 Simoni Petero amuvunira akagohe ati: "Tubwire uwo avuze uwo ari we.”

25 Uwo rero ahengamira inyuma, uko yari hano nyene mu gikiriza ca Yesu, aramubaza ati: "Ni nde ga Mugenzi?”

© 2007 Bible Society of Burundi.

26Yesu aramwishura ati: "Uwo nkorezamwo intore, nkayimuha, azoba ari we." Akojejemwo intore, arayikuramwo, ayihereza Yuda, umwana wa Simoni Isikaryota.

27Hanyuma y'iyo ntore, Satani aca yinjira muri we. Nuko Yesu aramubarira ati: "Ico ukora, gikore ningoga."

28Ariko muri abo bicaranye nta n'umwe yamenye ico abimubwiriye.

29Ariko kuko Yuda ari we yarafise umupfuko, bamwe bagize ngo Yesu yamubwiye, ngo Gura ibizodukwira ku musi mukuru, canke ngo agire ico aha aboro.

30Na we amaze kwakira intore, aca asohoka ako kanya, kandi hari mw'ijoro.

31Nuko amaze gusohoka, Yesu aravuga ati: "Noneho Umwana w'umuntu arashimagijwe, kandi Imana ishimagirijwe muri we.

32Kandi Imana, ko ishimagirijwe muri we, na yo izomushimagiriza muri yo, kandi izomushimagiza vuba.

33Bana bato, ndacari kumwe namwe akanya gato. Muzondondera, ariko, nk'uko nabwiye Abayuda nti: 'Aho nja ntimushobora gushikayo, ni ko none ndababwira namwe.'

34Ndabaha icagezwe gishasha, ni mukundane; nk'uko nabakunze, mube ari ko namwe mukundana.

35Ni mwagiriranira urukundo, ni ho bose bazomenya ko muri abigishwa banje."

36Simoni Petero aramubaza ati: "Mugenzi, uja hehe?" Yesu aramwishura ati: "Aho nja ntushobora kunkurikira ubu, ariko uzonkurikira hanyuma."

37Petero aramubaza ati: "Mugenzi, ni igiki kimbuza kugukurikira n'ubu?" Erega nzonakwigura.

38Yesu aramwishura ati: "Ugize ngo uzonyigura?" Ni ukuri ndakubwire koko, inkoko itarabika, uhava unyihakana gatatu.

## Yohana 14

1Ntimuhagarike imitima yanyu, mwizere Imana, nanje munyizere.

2I muhira kwa Data hari inzu nyinshi, iyo ziba zitariho, mba ndabibabwiye, kuko ngiye kubategurira ahanyu.

3Kandi ko ngiye kubategurira ahanyu, nzogaruka kubajana i wanje, ngo aho ndi namwe mube ari ho muba.

4Kandi iyo nja murazi inzira ijayo.

5Toma aramubwira ati: "Mugenzi, ntituzi iyo uja, dushobora dute kumenya inzira?"

6Yesu aramubwira ati: "Ni jewe nzira, ukuri n'ubugingo; nta wushika kuri Data ntamujanye.

© 2007 Bible Society of Burundi.

7Iyo muba mwaramenye, na Data muba mumuzi. Uhereye ubu muramuzi, kandi mwamubonye.

8Filipo aramubwira ati: "Mugenzi, twereke So, bizoba bihaye."

9Yesu aramubaza ati: "Mbega ko nabanye namwe igihe kingana gityo, nturakaruha umenya ga Filipo? Uwubonye jewe aba abonye Data; none uvuga ute ngo Twereke So?"

10Ntiwizeye ko jewe ndi muri Data, na Data ari muri jewe? Amajambo ndababwira si ayo nigeneye, ariko Data aba muri jewe ni we akora ibikorwa vyiwe.

11Ni munyizere ko ndi muri Data, na Data ari muri jewe, bibuze, mupfe kwizera ku bwo ibikorwa ubwavyo.

12Ni ukuri, ni ukuri ndababwire; uwunyizera, ibikorwa jewe nkora na we azobikora, kandi azokora ibibiruta, kuko jewe ngiye kwa Data.

13Kandi ico muzosaba cose mw'izina ryanje nzogikora, kugira ngo Data ashimagizwe mu Mwana.

14Ni mwagira ico musaba mw'izina ryanje, nzogikora."

15Ni mwankunda, muzokwitondera ivyagezwe vyanje,

16nanje nzosaba Data, na we azobaha uwundi Mwitsa, ngo azobane namwe ibihe bidashira,

17ni we Mpwemu w'ukuri, uwo abo isi badashobora kwakira, kuko batamubona, kandi batamuzi; mweho muramuzi, kuko abana namwe kandi azoba muri mwebwe.

18Sinzobasiga nk'impfuvyi, nzoza kuri mwebwe.

19Hasigaye igihe gito, abo isi ntibabe bakimbona, ariko mweho muzombona; kuko ndiho, namwe muzobaho.

20Uwo musi muzomenya ko ndi muri Data, namwe muri muri jewe, nanje ndi muri mwebwe.

21Uwuri n'ivyagezwe vyanje akavyitondera, uwo ni we ankunda, kandi uwunkunda azokundwa na Data, nanje nzomukunda, kandi nzomwihishurira.

22Yuda (atari Isikaryota), aramubaza ati: "Mugenzi, bibaye bite, ko ugira wihishurire twebwe, ntiwihishurire abo isi?"

23Yesu aramwishura ati: "Ni hagira uwunkunda, azokwitondera ijambo ryanje, kandi Data azomukunda, maze tuzoza kuri we, tubane na we.

24Uwutankunda ntiyitondera amajambo yanje, kandi ijambo mwumva si iryanje, ariko ni irya Data yantumye."

25Ivyo ndabibabariye nkiri kumwe namwe,

© 2007 Bible Society of Burundi.

26 ariko Umwitsa, ari we Mpwemu Yera, uwo Data azorungika mw'izina ryanje, ni we azobigisha vyose, kandi azobibutsa ivyo nababariye vyose.

27 Amahoro ndayabasigaranye, amahoro yanje ndayabagabiye. Jeho sindayabagabira nk'uko abo isi bagaba. Imitima yanyu ntihagarare, kandi ntitinye.

28 Mwumvise ko nababwiye nti: "Ndagiye, ariko nzobagarukako. Iyo muba munkunda, muba munezerejwe ni uko ngiye kwa Data, kuko Data ari we anduta.

29 Nuko none ndabibabwiye bitaraba, ngo aho bizobera muzokwizere.

30 Sinkivugana namwe vyinshi, kuko umwami w'isi ari mu kuza, yamara muri jewe nta kintu ahafise;

31 ariko ni ukugira ngo abo isi bamenye ko nkunda Data, kandi uko Data yangeze ko ari ko nkora. Ve hasi, tuve hano tugende."

## Yohana 15

1 Jewe ndi umuzabibu w'ukuri, kandi Data ni nyene wo.

2 Ishami ryose ryo muri jewe ritama, arikuraho; kandi iryama ryose ararituturira, ngo rirushirize kwama.

3 N'ubu mwebwe mumaze kwezwa kubwo ijambo nababwiye.

4 Ni mugume muri jewe, nanje ngume muri mwebwe. Nk'uko ishami ritabasha kwama ubwaryo, ritagumye mu muzabibu, ni ko namwe mutabibasha, mutagumye muri jewe.

5 Ni jewe muzabibu, namwe muri amashami; uwuguma muri jewe, nanje nkaguma muri we, uwo ni we yama cane, kuko ata co mubasha gukora mutamfise.

6 Umuntu ni ataguma muri jewe atabwa nk'uko ishami ritererwa inyuma y'umurima w'inzabibu, akuma; maze bakayegeranya, bakayaterera mu muriro, agasha.

7 Ni mwaguma muri jewe, amajambo yanje akabagumamwo, musabe ico mugomba cose, kizobabera kuno.

8 Muri ivyo Data arashimagizwa, ni mwama cane, kandi mukaba abigishwa banje."

9 Nk'uko Data yankunze, ni ko nanje nabakunze; ni mugume mu rukundo rwanje.

10 Ni mwitondera ivyagezwe vyanje, muzoguma mu rukundo rwanje, nk'uko nanje nitondeye ivyagezwe vya Data, nkaguma mu rukundo rwiwe.

11 Ivyo ndabibabwiye, kugira ngo umunezero wanje ubabemwo, kandi n'umunezero wanyu wuzuzwe.

12 Ngiki icagezwe canje: ni mukundane, nk'uko nabakunze.

13 Nta wogira urukundo ruruta urwo uko umuntu yigura abakunzi biwe.

14 Muri abakunzi banje, ni mwakora ivyo ndabategetse.

© 2007 Bible Society of Burundi.

15Sinkibita abashumba, kuko umushumba atamenya ico shebuja akora; ariko mweho nabise abakunzi, kuko ivyo numvanye Data vyose nabibamenyesheje.

16Si mwebwe mwantoranije, ariko ni jewe nabatoranije, nabashizeho kugira ngo mugende murama imbuto, kandi ngo imbuto zanyu zigumeho, kugira ngo ico muzosaba Data cose mw'izina ryanje, akibahe.

17Ivyo ndabibategetse kugira ngo mukundane.

18Isi ni yabanka, mumenye ko jewe yabanje kunyanka, itarabanka.

19Iyo muba abo isi, isi iba ikunze icayo, maze kuko mutari abo isi, ariko nabatoranije mu bo isi, ni co gituma isi ibanka.

20Mwibuke rya jambo nababwiye nti: "Umushumba ntaruta shebuja; namba barampamye, namwe bazobahama; namba baritondeye ijambo ryanje, n'iryanyu bazoryitondera.”

21Ariko ivyo vyose bazobibagirira babahora izina ryanje, kuko batazi uwantumye.

22Iyo ntaba naraje ngo ngire ico ndababarira, nta caha baba bafise, ariko none ntibari n'ico bireguza icaha cabo.

23Uwunyanka aba yanka na Data.

24Iyo ntaba narakoreye ibikorwa muri bo bitigeze gukorwa n'uwundi, nta caha baba bafise, ariko noneho twe na Data baratubonye, baraheza baratwanka.

25Ariko vyabaye bityo kugira ngo ijambo ryanditswe mu vyagezwe vyabo rishike, ngo Banyankiye ubusa.

26Ariko Umwitsa aho azozira, uwo nzobarungikira ava kuri Data, ni we Mpwemu w'ukuri akomoka kuri Data, uwo ni we azonshingira intahe,

27kandi namwe nyene muranshingira intahe, kuko mwari kumwe nanje uhereye mu bihe vya kera.

## Yohana 16

1Ico ndababaririye ivyo, ni ukugira ngo ntimuzotsitazwe.

2Bazobaca mu nsengero z'Abayuda, kandi igihe kigiye kuza, uwuzobica wese azogira ngo agiriye Imana ikimazi.

3Kandi ivyo bazobikora kuko batamenye Data, nanje ntibamenye.

4Ico ndababaririye ivyo, ni ukugira ngo igihe cavyo ni cashika, muzovyibuke ko nanje nabibabwiye. Uhereye ubwa mbere sinaribwabibabwire, kuko nari nkiri kumwe namwe.

5None ngira ngende ku wantumye, kandi nta n'umwe muri mwebwe arushe ambaza ati: "Uja hehe?”

© 2007 Bible Society of Burundi.

6Ariko kuko ndababariye ivyo, umubabaro waciye wuzura mu mitima yanyu.

7Ariko jewe ndababwira ukuri; Ikizogira ico kibamarira, ni uko jewe ngenda; kuko ni ntagenda, Umwitsa ntazoza kuri mwebwe; ariko ni nagenda nzomubarungikira.

8Uwo ni yaza, azohinyuza abo isi, abemeze ivyo icaha, ivyo ukugororoka n'ivyo urubanza;

9ivyo icaha, kuko batanyizeye,

10ivyo ukugororoka, kuko nja kwa Data, kandi namwe muzoba mutakimbona,

11ivyo imanza, kuko umwami w'iyi si yaciriwe urubanza.

12Nari ngifise vyinshi vyo kubabwira, ariko ntimushobora kuvyihanganira ubu.

13Ariko uwo Mpwemu w'ukuri ni yaza, azobarongora abashitse ku kuri kwose, kuko atazovuga ivyo yigeneye, ariko ivyo azokwumva vyose ni vyo azovuga, kandi azobamenyesha ibigira bize.

14Uwo azoshimagiza jewe, kuko azokwakira ku vyanje, akabibamenyesha.

15Ivyo Data afise vyose ni ivyanje, ni co gitumye mvuga nti: "Yakira ku vyanje, akabibamenyesha."

16Hasigaye igihe gito ntimube mukimbona, maze hazoca ikindi gihe gito musubire kumbona.

17Bamwe mu bigishwa biwe barabazanya bati: "Mbega ivyo atubwiye ni ibiki ngo Hasigaye igihe gito ntimube mukimbona, ngo maze hazoca ikindi gihe gito musubire kumbona, kandi ngo kuko nja kwa Data?"

18Kandi bati: "Ivyo atubwiye ni ibiki, ngo igihe gito?" Ntitumenye ico avuze ico ari co.

19Yesu amenya ko bagomba kumubaza, arababaza ati: "Mbega mubazanya ico ari co, ko mbababariye nti: "Hasigaye igihe gito ntimube mukimbona kandi hazoca ikindi gihe gito musubire kumbona?"

20Ni ukuri, ni ukuri ndababwire, mweho muzorira muboroge, ariko abo isi bo bazonezerwa; mweho muzobabara, ariko umubabaro wanyu uzocika umunezero.

21Umugore iyo aramutswe, aja mu mubabaro, kuko igihe ciwe kigeze, ariko iyo umwana amaze kuvuka ntaba acibuka kugorwa kwiwe, kuko anezerejwe n'uko umuntu avutse mw'isi.

22Ni ko namwe muri mu mubabaro, ariko nzosubira kubabona, kandi imitima yanyu izonezerwa, umunezero wanyu nta n'umwe azowubanyaga.

23Kuri uwo musi nta na kimwe muzombaza. Ni ukuri ndakubwire koko, ni hagira ico musaba Data cose azokibaha mw'izina ryanje.

© 2007 Bible Society of Burundi.

24Kugeza ubu nta co mwasavye mw'izina ryanje; musabe muzohabwa, ngo umunezero wanyu wuzuzwe.

25Ivyo ndabibabwiriye mu migani, ariko igihe kizoza sinzoba ngisubira kuvuganira namwe mu migani, mugabo nzobabwira ivya Data ndabifoboye.

26Kuri uwo musi muzosaba mw'izina ryanje, kandi sindababwira ngo nzobasabira Data.

27Kuko Data na we ubwiwe abakunda, kuko mwankunze kandi mwizeye ko naturutse ku Mana.

28Navuye kwa Data, nza mw'isi; ikindi, isi ndiko ndayivamwo, nje kwa Data.

29Abigishwa biwe baravuga bati: "Ubuho urabifoboye, nta mugani uduciriye.

30Ubuho tumenye ko uzi vyose, kandi ko ku bwawe utarinda ko hogira uwukubaza; ni co gituma twizera ko waturutse ku Mana."

31Yesu arabishura ati: "Mbega noneho murizeye?

32Igihe kigira kize, mbere kirashitse, aho muhava musabagira, umuntu wese aje mu vyiwe, munte jenyene, ariko sindi jenyene, kuko Data ari kumwe nanje.

33Ivyo ndabibabwiye, kugira ngo mugire amahoro muri jewe. Mw'isi muri n'amarushwa, ariko ni muhumure, jewe naranesheje isi."

## Yohana 17

1Yesu avuze ivyo, arangamiza mw'ijuru ati: "Data, igihe kirashitse; shimagiza Umwana wawe, ngo Umwana agushimagize;

2nk'uko wamuhaye ububasha ku bafise umubiri bose, ngo abo wamuhaye bose abahe ubugingo budashira.

3Ubu ni bwo bugingo budashira, ko bamenya wewe, Imana yonyene y'ukuri, n'uwo watumye, Yesu Kristo.

4Nagushimagije mw'isi, nonosoye igikorwa wampaye gukora.

5Na none Data, unshimagizanye nawe, unshimagirishije bwa bwiza nahoranye ndi kumwe nawe, isi itararemwa.

6Nahishuriye izina ryawe abantu wampaye mu b'isi; bari abawe, urabampa, kandi bitondeye ijambo ryawe.

7None bamenye yuko ivyo wampaye vyose biva kuri wewe;

8kuko amajambo wampaye nayabahaye, na bo bakayakira, bakamenya vy'ukuri ko naturutse kuri wewe; bakizera ko ari wewe wantumye.

9Ndabasabira; sinsabira abo isi, ariko nsabira abo wampaye, kuko ari abawe;

© 2007 Bible Society of Burundi.

10kandi ivyanje vyose ni ivyawe, n'ivyawe na vyo ni ivyanje, kandi nashimagijwe muri bo.

11Sinkiri mw'isi, ariko bo bari mw'isi, nanje ndaje kuri wewe. Data wera, ubazigamire mw'izina ryawe wampaye, ngo babe umwe nk'uko natwe turi.

12Nkiri kumwe na bo, nabazigamiye mw'izina ryawe wampaye. Narabashibamyeko, kandi nta n'umwe muri bo yapfuye rubi, atari wa mwana wo gupfa rubi, kugira ngo ivyanditswe bishike.

13Ariko none ndaje kuri wewe, kandi ibi ndabivuga ndi mw'isi, kugira ngo bagire umunezero wanje wuzure muri bo.

14Nabahaye ijambo ryawe; kandi ab'isi barabanka, kuko atari abo isi, nk'uko nanje ntari uwo isi.

15Sindagusaba ngo ubakure mw'isi, ariko ngo ubarinde wa Mubi.

16Si ab'isi, nk'uko nanje ntari uwo isi.

17Ubeze mu kuri, ijambo ryawe ni ryo kuri.

18Nk'uko wantumye mw'isi, ni ko nanje nabatumye mw'isi,

19kandi nanje niyeza kubwabo, kugira ngo na bo babe bejejwe mu kuri.

20Sinsabira aba gusa, ariko ndasabira n'abo bazonyizera ku bwo ijambo ry'aba,

21kugira ngo bose babe umwe, nk'uko wewe, Data, uri muri jewe, nanje nkaba muri wewe, ngo na bo babe ari ko baba muri twebwe, ngo isi yizere ko ari wewe wantumye.

22Nanje nabahaye ubwiza wampaye, ngo babe umwe, nk'uko natwe turi umwe.

23Jewe mbe muri bo, nawe ube muri jewe, ngo bahingurwe babe umwe, kugira ngo isi imenye ko ari wewe wantumye, ukabakunda, nk'uko wankunze.

24Data, abo wampaye ndagomba ko aho ndi na bo bahabana nanje, ngo barabe ubwiza bwanje wampaye, kuko wankunze itanguriro ry'isi ritarashirwaho.

25Data ugororotse, isi ntiyakumenye, ariko jewe narakumenye, n'aba na bo bamenye ko ari wewe wantumye.

26Nabamenyesheje izina ryawe, kandi nzoribamenyesha, ngo urukundo wankunze rube muri bo, nanje mbe muri bo."

## Yohana 18

1Yesu avuze ivyo, avanayo n'abigishwa biwe afata hakurya y'umugezi witwa Kidironi; aho hari itongo; ashikaho, bo n'abigishwa biwe.

2Kandi na Yuda amugura yari azi aho hantu, kuko Yesu yahora ajanayo n'abigishwa biwe kenshi.

© 2007 Bible Society of Burundi.

3Nuko Yuda amaze guhabwa n'abaherezi bakuru n'Abafarisayo ingabo z' abasoda, bo n'abagendanyi, ajayo, bari n'amatara, ibimuri n'ibirwanisho.

4Nuko Yesu amenye ibigira bimubeko vyose, arabasanganira, arababaza ati: "Murondera nde?"

5Na bo baramwishura bati: "Yesu Umunyanazareti." Arababwira ati: "Ni jewe." Kandi Yuda, amugura, yari ahagararanye na bo.

6Amaze kubabarira ati: "Ni jewe," bagenza imigongo, bagwa hasi.

7Na we asubira kubabaza ati: "Murondera nde?" Na bo bati: "Yesu Umunyanazareti.

8Yesu arabishura ati: "Nababwiye ko ari jewe; asangwa ari jewe murondera, mureke aba, bigire."

9Ukwo kwari ukugira ngo rya jambo yavuze rishike, ngo mu bo wampaye nta n'umwe najimije.

10Simoni Petero yari n'inkota, arayisokora, aca ugutwi kw'i buryo kw'umuntu w'umuherezi mukuru, uwo muntu yitwa Malikusi.

11Maze Yesu abarira Petero ati: "Subiza inkota mu rwubati, mbega igikombe Data yampaye ndeke kukinywa?"

12Nuko abasoda n'umukuru w'intwazangabo zabo n'abagendanyi b'Abayuda bafata Yesu, baramuboha,

13babanza kumujana kwa Anasi, kuko yari sebukwe wa Kayafa umuherezi mukuru wo muri uwo mwaka. "

14Kandi Kayafa ni we yari yagiriye inama Abayuda, yuko ari ibibereye ko umuntu umwe apfira ubwo bwoko.

15Simoni Petero akurikira Yesu, bo n'uwundi mwigishwa. Uwo mwigishwa yari azinanyi n'umuherezi mukuru, ashikana na Yesu mu rugo rw'uwo muherezi mukuru,

16ariko Petero asigara ahagaze kw'irembo. Wa wundi mwigishwa yari azinanyi n'umuherezi mukuru, ashika kw'irembo, avugana n'umukumirizi, araheza ashikana Petero imbere.

17Maze iyo ncoreke ikumira ibaza Petero ati: " "Mbega nawe uri mu bigishwa b'uwo muntu?" Petero ati: "Oya, sindimwo." "

18Abashumba n'abagendanyi bari bahagaze bacanye umuriro w'amakara, kuko hari imbeho, bariko barota; kandi Petero na we yari kumwe na bo, ahagaze yota.

19Nuko umuherezi mukuru asiguza Yesu ivyo abigishwa biwe n'inyigisho ziwe.

20Yesu aramwishura ati: " "Nabarira abo isi ndavyeruye, nahora nigishiriza mu nsengero z'Abayuda no mu rundi rusengero aho Abayuda bose bakoranira, nta co navugiye mu mpisho.

© 2007 Bible Society of Burundi.

21Umbarije iki? Baza abahora bavyumva ico nababariye: erega ni bo bazi ivyo navuze.”

22Avuze atyo, umwe mu bagendanyi ahagazeho akubita Yesu urushi ati: "Uko ni ko wishura umuherezi mukuru?”

23Yesu aramubaza ati: "Namba mvuze nabi, nyagiriza ico kibi; ariko namba ari neza, unkubitiye iki?”

24Nuko Anasi amurungika aboshwe kwa Kayafa umuherezi mukuru.

25Simoni Petero yari ahagaze yota; nuko baramubaza bati: "Mbega nawe uri mu bigishwa biwe?" Na we arahakana ati: "Oya, sindimwo.”

26Umwe mu bashumba b'umuherezi mukuru, yari incuti y'umwe Petero yaciye ugutwi, aramubaza ati: "Sinakubonye uri kumwe na we muri rya tongo?" “

27Maze Petero yongera kubihakana, ako kanya inkoko ica irabika.

28Bakura Yesu kwa Kayafa, bamujana mu nzu y'iburaniro; hari mu mutwenzi. Ariko ubwabo ntibinjira mu nzu y'ibonaniro, ngo ntibihumanye, kugira ngo babone ingene barya Pasika.

29Kubwo ivyo Pilato arasohoka aja aho bari, arababaza ati: " "Ikirego mufise kuri uwo muntu ni igiki?”

30Baramwishura bati: "Ugira ngo uwu, iyaba atakoze ibibi tuba tumukuzaniye?”

31Nuko Pilato arababwira ati: "Ni mumujane mwebwe, mumucire urubanza nk'uko ivyagezwe vyanyu bivuga." Abayuda baramwishura bati: "Erega twebwe ntitwemererwa kwica umuntu.”

32Kwari ukugira ngo ijambo rya Yesu rishike, iryo yavuze abamenyesha urupfu azopfa urwo ari rwo.

33Nuko Pilato asubira mu gisagara gikikijwe n'uruhome rw'amabuye, ahamagaza Yesu, aramubaza ati: "Ni wewe Mwami w'Abayuda?”

34Yesu ati: "Mbega ivyo ubibajije kubwawe, canke n'abandi bakubariye ivyanje?

35Pilato ati: "Mbega nanje ndi Umuyuda? Abo mu bwoko bwanyu n'abaherezi bakuru ni bo bakunzaniye. Wakoze iki?”

36Yesu aramwishura ati: "Ubwami bwanje si ubwo muri iyi si; iyaba ubwami bwanje bwari ubwo muri iyi si, abagendanyi banje baba barwanye, ngo simpabwe Abayuda. Ariko noneho ubwami bwanje si ubwo ino.”

37Nuko Pilato aramubaza ati: "Ubwo wewe uri umwami?" Yesu ati: "Ni wewe uvyivugiye ko ndi umwami." Iki ni co navukiye, kandi iki ni co canzanye mw'isi, ni ukugira ngo nshingire intahe ukuri. Uwo ukuri wese yumva ijwi ryanje.

38Pilato aramubaza ati: "Mbega ukuri ni iki?" Amaze kuvuga ivyo, asubira gusohoka, aja aho Abayuda bari, arababwira ati: "Jewe nta kibi nabonye kuri we.

© 2007 Bible Society of Burundi.

39Ariko musanganywe umugenzo ko ndabarekurira umwe mu misi ya Pasika; none
muragomba ko ndabarekurira umwami w'Abayuda?”

40Nuko basubira gusemerera bati: "Si uyo, ariko turekurire Baraba." Yamara Baraba
yari umwambuzi.

## Yohana 19

1Maze Pilato afata Yesu, aramukubitisha.

2Abasoda na bo batsiba igitsibo c' amahwa bakimwambika mu mutwe, baraheza
bamwambika impuzu itukura y'agaciro.

3Baramwegera bati: "Ndagize bwakeye, Mwami w'Abayuda." Maze bamukubita
amakofe.

4Maze Pilato asubira gusohoka, arababwira ati: "Ehe ndamusohokanye aho muri, ngo
mumenye ko ata kibi nabonye kuri we.”

5Nuko Yesu asohoka yambaye ico gitsibo c'amahwa na ya mpuzu itukura y'igiciro
kinini. Pilato arababwira ati: "Ehe raba uwo muntu !”

6Maze abaherezi bakuru n'abagendanyi bamubonye, barasemerera bati: "Mubambe,
mubambe." Pilato arababwira ati: "Ni mube ari mwebwe mumwishorerera,
mumubambe, kuko jewe ata gicumuro mbonye kuri we.”

7Abayuda baramwishura bati: "Twebwe dufise icagezwe, kandi kubwo ico cagezwe
akwiye gupfa, kuko yigize Umwana w'Imana.”

8Nuko Pilato yumvise iryo jambo, arushiriza gutinya.

9Asubira kwinjira mu kibanza baciramwo imanza, abaza Yesu ati: "Uri uwa hehe?"
Ariko Yesu ntiyamwishura na rimwe.

10Nuko Pilato aramubaza ati: "Nta co umbarira? Ntuzi yuko mfise ububasha bwo
kukurekura, kandi mfise ububasha bwo kukubamba?”

11Yesu aramwishura ati: "Nta bubasha wari ufise kuri jewe, kiretse ubuhawe buvuye
hejuru, ni co gituma uwakunshikirije afise icaha kirengeje.”

12Uhereye aho Pilato arondera uburyo bw'uko yomurekura, ariko Abayuda
barasemerera bati: "Ni warekura uwo, ntuzoba ucuzura na Kayisari, kuko uwigira
umwami wese aba agararije Kayisari.”

13Nuko Pilato yumvise ayo majambo, asohora Yesu, yicara ku ntebe y'imanza, yari
ahantu hitwa Musezero w' amabuye, mu Giheburayo hitwa Gabata.

14Wari umusi wo kwitegurira Pasika, hari nk'isaha zitandatu. Abwira Abayuda ati:
"Ehe raba umwami wanyu.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

15 Na bo barasemerera bati: "Mukureho, mukureho, umubambe." Pilato arababaza ati: "Mbambe umwami wanyu?" Abaherezi bakuru bati: "Nta mwami dufise, atari Kayisari." “

16 Araheza aramubahereza, ngo abambwe. Nuko basumira Yesu

17 Avayo, yiyikorereye umusaraba, ashika ahantu hitwa Nyagihanga, mu Giheburayo hitwa Gologota;

18 bamubambaho, hamwe n'abandi babiri, umwe hirya, uwundi hino, Yesu yari hagati.

19 Pilato yandika icandiko, agishira ku musaraba; canditswe ngo YESU UMUNYANAZARETI UMWAMI W'ABAYUDA.

20 Benshi mu Bayuda basoma ico candiko, kuko aho hantu Yesu yabambwe hari hafi y'igisagara; kandi cari canditswe mu Giheburayo no mu Kiroma no mu Kigiriki.

21 Nuko Abaherezi bakuru b'Abayuda babwira Pilato bati: " "Nta co wandika ngo Umwami w'Abayuda, ariko ko yivuze ngo Ni jewe Mwami w'Abayuda.”

22 Pilato arabishura ati: "Ico nanditse, nacanditse.”

23 Nuko abasoda, bamaze kubamba Yesu, bakira impuzu ziwe, bazigaburamwo imigabane ine, umusoda wese umugabane wiwe; hasigara umutamana. Kandi uwo mutamana ntiwari ufise umubariro, wari ujishwe kumwe, uhereye hejuru kugeza hasi.

24 Nuko baravugana bati: "Ntituwutabure, tuwupfindire, ugire uwuwegukiye." Kwari ukugira ngo ivyanditswe bishike,ngo Bagabuye impuzu zanje,Bapfindira umwambaro wanje. Ivyo ni ko abasoda babikoze.

25 Ariko i ruhande y'umusaraba wa Yesu hari hahagaze nyina, nyinabo, Mariya muka Kilopa na Mariya Magadalene.

26 Yesu abonye nyina na wa mwigishwa yakunda ahagazeho, abarira nyina ati: "Nyina wanje, nguwo umwana wawe.”

27 Maze abarira wa mwigishwa ati: "Nguwo nyoko." " Uhereye ako kanya uwo mwigishwa ajana Mariya i we.

28 Hanyuma y'ivyo Yesu amenye yuko noneho vyose birangiye, kugira ngo icanditswe gishike, aravuga ati: " "Ndafise inyota.”

29 Aho hantu hari hateretse inkono yuzuye inkarisha, nuko bashira sipongo yuzuyemwo inkarisha kw' irenga, bayirungika ku munwa wiwe.

30 Yesu amaze kuyihabwa, aravuga ati: "Birarangiye." " Araheza ajondamika umutwe, umutima uraca.

31 Uwo musi wari uwo kwitegurira Pasika; nuko kugira ngo ababambwe ntibagume ku misaraba kw'isabato, kuko uwo musi w'isabato wari mukuru, Abayuda basaba Pilato ngo amaguru yabo avunwe, kandi ngo babamburwe.

© 2007 Bible Society of Burundi.

32Maze abasoda baraza, bavuna amaguru y'uwa mbere n'ayo uwundi yabambanywe na we.

33Ariko bashitse kuri Yesu, babonye amaze gupfa, ntibaba bakimuvuna amaguru,

34ariko umwe mu basoda amucumita icumu mu rubavu; ako kanya hava amaraso n'amazi.

35Uwabibonye ni we yabishingiye intahe kandi intahe yiwe ni iyo ukuri, kandi arazi ko avuga ukuri, kugira ngo namwe mwizere.

36Kuko ivyo vyabayeho kugira ngo icanditswe gishike, ngo nta n'igufa ryiwe rizovunwa. "

37Kandi hari ikindi canditswe, kivuga ngo Bazobona uwo bacumise.

38Hanyuma y'ivyo Yosefu Umunyarimataya, yari umwigishwa wa Yesu, ariko mu mpisho, ku bwo gutinya Abayuda, yaka Pilato ikiziga ca Yesu ngo akijane, Pilato aremera; nuko araza ajana ikiziga ciwe.

39Kandi haza na Nikodemu, umwe yaza kuri Yesu mw'ijoro ubwa mbere, azana ikivange c'isenga n'imbazi nk'ibilo mirongo itanu.

40Nuko bakira ikiziga ca Yesu, bakizingira mu mpuzu zera derere, hamwe n'ivyo bimota neza, nk'uko umugenzo w'Abayuda wo guhamba wari uri.

41Kandi aho hantu yabambwe hari itongo; kandi muri iryo tongo hari imva nshasha itarahambwamwo umuntu;

42aho ni ho bahamvye Yesu, kuko wari umusi wo kwitegura kw'Abayuda, kandi iyo mva ikaba hafi.

## Yohana 20

1Ku wa mbere w'imisi indwi mu gaturuturu, hatarabona, Mariya Magadalene aja ku mva, abona ikibuye gikuwe ku mva;

2agenda ariruka ashikira Simoni Petero na wa mwigishwa wundi Yesu yakunda, arababwira ati: "Bakuye Umwami Yesu mu mva, kandi ntituzi aho bamushize."

3Nuko Petero arasohoka, na wa mwigishwa wundi, baja ku mva.

4Bose birukira icarimwe, kandi wa mwigishwa wundi asiga Petero, amutanga ku mva.

5Yunamye, arungurutseyo, abona za mpuzu zera derere zirambitseho, ariko ntiyinjira.

6Maze Simoni Petero arashika amukurikiye, yinjira mu mva, abona za mpuzu zirambitseho,

7n'igitambara cari mu mutwe wiwe, kitarambitse hamwe na za mpuzu, ariko kizinze kiri ahaco ukwa conyene.

© 2007 Bible Society of Burundi.

8 Ni ho hinjiye wa mwigishwa wundi na we, umwe yabanje gushika ku mva, abibonye arizera.

9 Kuko bataribwamenye ivyanditswe yuko akwiye kuzozuka mu bapfuye.

10 Maze abo bigishwa bavayo basubira i wabo.

11 Mariya yari ahagaze ku mva arira. Akiriko ararira, arunama, arunguruka mu mva,

12 abona abamarayika babiri bambaye impuzu zera, bicaye umwe ku mutwe, uwundi mu mirambizo y'aho ikiziga ca Yesu cari kiryamye.

13 Baramubaza bati: "Mbega nyina wanje, urizwa ni iki?" Na we ati: "Ni uko bakuyeho Umwami wanje, nanje nkaba ntazi aho bamushize."

14 Avuze ivyo, arakebuka, abona Yesu ahagaze, ariko ntiyamenya ko ari Yesu.

15 Yesu aramubaza ati: "Mbega nyina wanje, urizwa n'iki? Urondera nde?" Na we yiyumvira ko ari umurimyi waho, aramubwira ati: "Mugenzi, namba ari wewe wamukuye hano, ndangira aho wamushize, ndamukureyo."

16 Yesu aramuhamagara ati: "Mariya." Na we arahindukira, amwitaba mu Giheburayo ati: "Rabuni (risobanurwa ngo Mwigisha)."

17 Yesu aramubwira ati: "Ntunkoreko, kuko ntaraduga kwa Data; ariko genda ku bavukanyi banje, ubabarire uti: 'Agira aduge kwa Se ari we So' kandi ku Mana yiwe ari yo Mana yanyu."

18 Mariya Magadalene aragenda, abarira abigishwa inkuru ati: "Nabonye Umwami;" " abadondera ivyo yamubariye.

19 Nuko kuri uwo musi bugorovye, ni wo musi wa mbere w'imisi indwi, imiryango yari yugaye aho abigishwa bari, kubwo gutinya Abayuda, Yesu araza abahagarara hagati, arababwira ati: " "Amahoro abe muri mwebwe."

20 Amaze kuvuga atyo, abereka ibiganza vyiwe no mu rubavu. Maze abigishwa baranezerwa, babonye Umwami.

21 Yesu yongera kubabwira ati: "Amahoro abe muri mwebwe." Nk'uko Data yantumye ni ko nanje nabatumye."

22 Avuze ivyo, abahumekerako ati: "Ni mwakire Mpwemu Yera.

23 Kandi abo muzoharira ivyaha bose, bazoba babihariwe; ariko abo mutazobiharira bose, ntibazoba babihariwe."

24 Ariko Toma ari we Hasa, umwe wo muri bamwe icumi na babiri, ntiyari kumwe na bo aho Yesu yaza.

25 Abandi bigishwa baramubwira bati: "Twabonye Umwami." Na we arabishura ati: "Ni ntabona inkovu z'imambo mu biganza vyiwe, ngo nkoze urutoke rwanje mu nkovu z'imambo, ngo nshire urushi mu rubavu rwiwe, sinemera."

© 2007 Bible Society of Burundi.

26Maze imisi umunani ishize abigishwa bari mu nzu ukundi gusha, na Toma bari kumwe. Yesu araza, imyango yari yugaye, abahagarara hagati ati: "Amahoro abe muri mwebwe."

27Maze abwira Toma ati: "Zana hano urutoke rwawe, urabe ibiganza vyanje; zana n'urushi, urushire mu rubavu rwanje, nta co uba uwutizera, ariko ube uwizeye."

28Toma aramwishura ati: "Mwami wanje, kandi Mana yanje."

29Yesu aramubwira ati: "Wijejwe n'uko umbonye. Harahiriwe abatarinze kubona, yamara bakizera."

30Hariho n'ibindi bimenyetso vyinshi Yesu yakoreye imbere y' abigishwa, bitanditswe muri iki gitabo.

31Ariko ibi vyandikiwe kugira ngo mwizere yuko Yesu ari we Kristo, Umwana w'Imana, no kugira ngo mwizeye mugire ubugingo mw'izina ryiwe.

## Yohana 21

1Hanyuma y'ivyo Yesu yiyereka abigishwa ukundi gusha, ari ku kiyaga c'i Tiberiya. Kandi uburyo yiyerekanye ni ubu:

2Simoni Petero, Toma ari we Hasa bari kumwe na Natanayeli w'i Kana i Galilaya, n'abana ba Zebedayo, n'abandi bigishwa babiri.

3Simoni Petero arababwira ati: "Ndagiye kuroba." Na bo bati: "Natwe turajana nawe." Barikora, batambukira mu bwato. Muri iryo joro ntibagira ico bafata.

4Umutwenzi ugitambika, Yesu ahagarara ku musenyi, ariko abigishwa ntibamenya ko ari we.

5Nuko Yesu arababaza ati: "Bana, hari ico kurya mufise?" Bati: "Oya."

6Arababwira ati: "Ni muterere urusenga i buryo bw'ubwato, muraronka." Nuko baraterera, ntibaba bakibasha kurukwega, kuko ifi zari isinzi.

7Wa mwigishwa Yesu yakunda abwira Petero ati: "Ni Umwami Yesu." Simoni Petero yumvise ko ari Umwami, akenyera impuzu, kuko yari gusa, araheza yikubita mu kiyaga.

8Ariko abandi bigishwa baza mu bwato, kuko bari hafi y'umusenyi, hari nk'intambuko ijana, bakwega urusenga rurimwo ifi.

9Bafashe i musozi, babonaho umuriro w'amakara n'ifi zigeretseko, n'umutsima.

10Yesu arababwira ati: "Ni muzane ifi ku zo muhejeje kuroba."

11Simoni Petero aja mu bwato, akwegera urusenga i musozi rwuzuye ifi nininini ijana na mirongo itanu na zitatu, kandi naho zari zingana zityo, urusenga ntirwacitse.

12Yesu arababarira ati: "Ni muze murye." " Ariko mu bigishwa ntihagira uwutinyuka kumubaza ati: "Uri nde?" Kuko bari bamenye ko ari Umwami Yesu.

© 2007 Bible Society of Burundi.

13Yesu araza, yakira umutsima, arawubaha, n'ifi ni uko.

14Ubwo bwari ubugira gatatu Yesu yiyereka abigishwa, amaze kuzuka mu bapfuye.

15Nuko barangije kurya, Yesu abaza Simoni Petero ati: " "Simoni, umwana wa Yohana, mbega urankunda kurusha aba?" Na we ati: "Ego, Mugenzi, wewe urazi ko nkunogera." Aramubwira ati: "Ahura imyagazi y'intama zanje."

16Yongera kumubaza ubugira kabiri ati: "Simoni, umwana wa Yohana, mbega urankunda?" Na we ati: "Ego, Mugenzi, wewe urazi ko ndagukunda." Aramubwira ati: "Ragira intama zanje."

17Amubaza ubugira gatatu ati: "Simoni, umwana wa Yohana, mbega urankunda?" Petero arababara, kuko yamubajije ubugira gatatu ngo mbega urankunda? Aramwishura ati: "Mugenzi, weho urazi vyose, urazi ko ndagukunda." Yesu aramubwira ati: "Ahura intama zanje."

18Ni ukuri ndakubwire koko; ukiri umusore, warikenyeza, ukaja aho ugomba; ariko aho uzosazira, uzogorora amaboko, uwundi agukenyeze, akujane aho utagomba.

19Icatumye avuga atyo, kwari ukwerekana urupfu azopfa, ashimagirisha Imana. Amaze kuvuga atyo, aramubarira ati: "Nkurikira."

20Petero arakebuka, abona wa mwigishwa Yesu yakunda abakurikiye, umwe yari yegamiye mu gikiriza ca Yesu hamwe basangira, akamubaza ati: "Mugenzi, ni nde azokugura?"

21Nuko Petero amubonye, abaza Yesu ati: "Mugenzi, uwu we bizoba bite?"

22Yesu aramwishura ati: "Namba ngomba ko azogumaho kugeza aho nzozira, bigutwaye iki?"Wewe nkurikira. "

23Ni co catumye iri jambo rikwira mu bavukanyi, ngo uwo mwigishwa ntazopfa. Ariko Yesu ntiyamubwiye ko atazopfa, ariko yavuze ati: "Namba ngomba ko agumaho kugeza aho nzozira, bigutwaye iki?"

24Uwo ni wa mwigishwa yashingiye intahe ivyo, kandi ni we yavyanditse, kandi natwe tuzi yuko intahe yiwe ari iyo ukuri.

25Ariko hariho n'ibindi vyinshi Yesu yakoze, vyokwandikwa bidondowe kimwekimwe, ngira ngo n'isi na yo ntiyokwirwamwo ibitabo vyokwanditswe."

© 2007 Bible Society of Burundi.

# Igitabo C' Ivyakozwe N'intumwa

## Igitabo C' Ivyakozwe N'intumwa 1

1Teyofilo we, muri ca gitabo ca mbere nanditse, mvuga ivyo Yesu yatanguye gukora no kwigisha vyose,

2gushitsa ku musi yadugijwe mw'ijuru, ahejeje gusigarana amategeko intumwa muri Mpwemu Yera, zimwe yatoranije.

3Kandi amaze kubabazwa, abiyereka ari muzima atanga ibimenyetso vyinshi, ababonekera imisi mirongo ine, avuga ivyo ubwami bw'Imana.

4Maze akoranye na bo, arabihanikiriza ngo ntibave i Yerusalemu ati: "Ariko murorere isezerano rya Data, iryo mwanyumvanye.

5Kuko Yohana yabatirisha amazi, ariko mweho, mu misi itari myinshi, muzobatizwa na Mpwemu Yera."

6Nuko bakoranye, baramubaza bati: "Mwami, iki gihe ni co ugira ugarukane ubutware bw'Abisirayeli?"

7Arabishura ati: "Si ivyanyu kumenya imisi canke ibihe Data yashinze n'ububasha bwiwe wenyene;

8ariko muzohabwa ubushobozi, Mpwemu Yera ni yabazako, muzoba ivyabona vyo kunshingira intahe i Yerusalemu, i Yudaya hose, i Samariya no gushitsa ku mpera y'isi. "

9Amaze kuvuga atyo, aduzwa babona. Igicu kimukura mu maso yabo.

10Bagihanze amaso mw'ijuru akigenda, abagabo babiri bambaye impuzu zera bahagarara i ruhande yabo;

11barababaza bati: "Yemwe bagabo b'i Galilaya, ni iki gitumye muhagaze muraba mw'ijuru? Uwo Yesu, abakuwemwo, akaduzwa mw'ijuru, azoza atyo, nk'uko mumubonye aja mw'ijuru. "

12Buno basubira i Yerusalemu, bavuye ku musozi witwa Elayono, uri hafi y'i Yerusalemu nk'urugendo rwemewe kugendwa kw'isabato.

13Bashitseyo, barurira baja mw'igorofa hejuru, aho bari batse indaro, ari Petero, Yohana, Yakobo, Andereya, Filipo, Toma, Barutolomayo, Matayo, Yakobo umwana wa Alufayo, Simoni Zelote na Yuda umwana wa Yakobo.

14Abo bose basenga badahumeka n'umutima uhuye, hamwe n'abagore, na Mariya nyina wa Yesu, hamwe n'abavukanyi biwe ba Yesu.

15Muri iyo misi Petero ava hasi ahagarara hagati y'abavukanyi biwe, (hari hakoraniye ishengero ry'abantu nk'ijana na mirongo ibiri), aravuga

© 2007 Bible Society of Burundi.

16 ati: "Bagabo bavukanyi, ivyanditswe Mpwemu Yera yari yaravugiye mu kanwa ka Dawidi kuri Yuda, ntivyobuze gushika, ingene yarongoye abaja gufata Yesu,

17 kuko yari yaharuwe muri twebwe, agahabwa umugabane w'iki gikorwa. “

18 (Kandi uwo muntu amaze kugura ubwatsi ku vyo yahaweko ikiguzi co kugabitanya kwiwe, agwa yubamye, araturika, amara yiwe yose araseseka.

19 Bimenyekana mu baba i Yerusalemu bose, ni co catumye ubwo bwatsi mu rurimi rwabo babwita Akelidama, risobanurwa ngo Ubwatsi bw'amaraso. )

20 Kuko mu gitabo ca Zaburi handitswe, ngo I we hasigare umusaka, Kandi ntihakagire uwundi ahaba, kandi ngo Ububwiriza bwiwe busubiremwo uwundi.

21 Nuko muri abo bagabo twahora tugendana uko bukeye uko bwije igihe cose Umwami Yesu yari akiri muri twebwe,

22 utanguriye ku kubatiza kwa Yohana ukageza ku musi yadukuriwemwo, aduganywe, umwe muri bo akwiye kuba icabona hamwe natwe co gushingira intahe ukuzuka kwiwe.

23 Bahagarika babiri, umwe ni Yosefu ari we Barusaba, irindi ni Yusito, uwundi na we ni Matiya.

24 Barasenga bati: "Mwami, ni wewe uzi imitima y'abantu bose, none werekane uwo utoranije muri aba bompi

25 gusubira mu gishingo ca Yuda muri iki gikorwa no kuba intumwa, ivyo yataye akaja ahiwe. “

26 Bakoresha ubupfindo, bwerekana Matiya, nuko aharuranwa n'intumwa icumi n'imwe.

## Igitabo C’ Ivyakozwe N’intumwa 2

1 Umusi wa Pentekote ushitse, bose bari bakoraniye ahantu hamwe.

2 Haza igihinda kivuye mw'ijuru giturumbuka, nk'uguhuhuta kw'umuyaga w'inkomezi, gikwira hose mu nzu bicayemwo.

3 Hababonekera ibirimi vyigabanije, nk'ivyo umuriro; bibajako umwumwe.

4 Bose buzuzwa Mpwemu Yera, batangura kuvuga izindi ndimi, uko Mpwemu abahaye kuzivuga.

5 I Yerusalemu hari Abayuda bamyeho, abagabo bubaha Imana, bari baravuye mu mahanga yose yo musi y'ijuru.

6 Ico gihinda cumvikanye, hakorana abantu benshi, barajorerwa, kuko umuntu wese yumvise ururimi rw'i wabo baruvuga.

7 Barumirwa bose, baratangara bati: "Mbega aba bose bavuga si Abanyagalilaya?

© 2007 Bible Society of Burundi.

8Kandi ni igiki gitumye twese tubumva bavuga indimi z'i wacu izo twavukanye?

9Turi Abapariti, Abamedi, Abelamiti, abamye i Mesopotamiya, i Yudaya, i Kapadokiya, i Ponto, muri Asiya,

10i Furugiya, i Pamfiliya, mu Misiri, mu bihugu vy'i Libuwa bihereranye n'i Kureni, abo i Roma bagerereye ino, Abayuda, bo n'abatoye idini yabo,

11Abakirete n'Abarabo, tukabumva bavuga mu ndimi zacu ibitangaza vy'Imana. "

12Bose barumirwa barazazanirwa, barabazanya bati: "Ibi ni ibiki? "

13Ariko abandi barabanegura bati: "Baborewe igisama. "

14Ariko Petero ahagararana na bamwe icumi n'umwe, avuga n'ijwi rirenga ati: "Yemwe Bayuda n'ababa i Yerusalemu mwese, ibi ni mubimenye, kandi ni mwumvirize amajambo yanje. "

15Aba ntibaborewe nk'uko mwiyumvira, kuko ubu ari isaha zitatu z'umusi,

16ariko ivyo ni ivyavuzwe n'uwavugishwa n'Imana Yoweli

17ati: "Bizoba mu misi y'iherezo, ni ko Imana yagize, Nzosuka Mpwemu wanje ku bari n'umubiri bose. Kandi abahungu n'abakobwa banyu bazovugishwa nanje, N'imisore yanyu izobona ivyo yeretswe, N'abatama banyu bazorota inzozi. "

18Mbere n'abasavyi banje b' abahungu n'abakobwa muri iyo misi Nzobasukako Mpwemu wanje, bavugishwe nanje.

19Nzoshira utwumiza hejuru mw'ijuru, N'ibimenyetso hasi kw'isi, Amaraso, umuriro no gupfunduka kw'umwotsi.

20Izuba rizocura umwiza, N'ukwezi guhinduke amaraso, Hataraza uwo musi mukuru rurangiranwa w'Uhoraho.

21Kandi umuntu wese azokwambaza izina ry'Uhoraho azokizwa.

22Yemwe bagabo b'Abisirayeli, ni mwumve aya majambo: Yesu Umunyanazareti, umuntu Imana yamubashimagirishije intahe ibitanganza, utwumiza n'ibimenyetso, ivyo Imana yamukoresheje hagati yanyu, nk'uko mubizi ubwanyu;

23uwo muntu amaze gutangwa n'Imana ivyishakiye, irabimenye bitaribwabe, mumubambisha amaboko y'abagararariji, muramwica.

24Ariko Imana yaramuzuye, ibahoye imigozi y'urupfu, kuko bitashobotse ko rumugumya.

25Kuko Dawidi yavuze ivyo uwo ati: "Nabonye Uhoraho imbere yanje imisi yose, kuko ari i buryo bwanje, ngo sinyiganyige. "

26Ni co gituma umutima wanje uhimbarwa, ururimi rwanje rukanezerwa, Kandi n'umubiri wanje uzoruhukana ivyizigiro.

© 2007 Bible Society of Burundi.

27Kuko utazoreka ubugingo bwanje ngo buje i kuzimu, Kandi ntuzotanga Uwera wawe ngo azobore.

28Wamenyesheje inzira z'ubugingo, Mu maso hawe uzohanyuzurisha akanyamuneza.

29Bagabo bavukanyi, si ikingora kubabarira ndavyeruye ivya sogokuruza mukuru Dawidi, yuko yapfuye, agahambwa, n'imva yiwe iri ngaha ino muri twebwe gushika n'ubu.

30Nuko, kuko yari uwavugishwa n'Imana, akamenya ko Imana yamurahiye indahiro, ko izoshira ku butware bwiwe uwamutse mu bura bwiwe,

31yavuze ivyo ukuzuka kwa Kristo abibonye bitaribwabe, yuko atarekewe mu kuzimu, kandi n'umubiri wiwe ata ho wigeze ubora.

32Uwo Yesu Imana yaramuzuye, natwe twese turi ivyabona vyo gushingira intahe ivyo.

33Nuko amaze gushirwa hejuru n'ukuboko kw'i buryo kw'Imana, kandi ashikirijwe na Se isezerano, ari ryo Mpwemu Yera, none asutse ico muriko murabona kandi mwumva.

34Kandi Dawidi ntiyaduze mw'ijuru, ariko ubwiwe yaravuze ati: "Uhoraho yabariye Umwami wanje Ati: ' Icara i buryo bwanje,’

35Ushitse aho nzohindurira abansi bawe indava yo musi y'ibirenge vyawe. “

36Nuko abo mu muryango wa Isirayeli bose, ni bamenye badakekeranya yuko Imana yamugize Umwami na Kristo, ari we Yesu umwe mwabamba.

37Bumvise ivyo, bibacumita mu mitima, babaza Petero n'izindi ntumwa bati: "Bagabo bavukanyi mbega tugire dute? “

38Petero arabishura ati: "Ni mwihane, umuntu wese muri mwebwe abatizwe mw'izina rya Yesu Kristo, mubone guharirwa ivyaha vyanyu, kandi muzohabwa ingabire, ari yo Mpwemu Yera.

39Kuko isezerano ari iryanyu kandi ari iryo abana banyu, n'abari kure bose, abazohamagarwa bose n'Umwami Imana yacu. “

40Kandi ashingisha intahe ayandi majambo menshi, arabahanura ati: "Ni mwikize abo iki gihe kigoramye. “

41Nuko abemeye amajambo yiwe barabatizwa; abongewe kuri uwo musi ku bari basanzweho bari nk'ibihumbi bitatu.

42Bashishikara cane ivyo intumwa zigisha, kugira ubumwe, bamanyagura umutsima hamwe no gusenga.

43Umuntu wese aterwa n'ubwoba. Kandi utwumiza n'ibimenyetso vyinshi vyakorwa n'intumwa.

44Abizeye bose baba hamwe, basangira ivyabo vyose.

© 2007 Bible Society of Burundi.

45Amatongo yabo n'ibintu vyabo barabigurisha, bakabibagabanganya bose, bakurikije ukuntu umuntu wese akenye.

46Kandi imisi yose bashishikara kuja mu rusengero n'umutima uhuye, kandi i wabo bamanyagura umutsima, bakarya banezerewe n'imitima itagira akarohe,

47bahimbaza Imana, kandi na bo bashimwa n'abantu bose. Umwami Imana akabongera imisi yose abama barakizwa.

## Igitabo C' Ivyakozwe N'intumwa 3

1Petero na Yohana bariko baraduga baja mu rusengero mu gihe co gusenga, ni co saha icenda.

2Hari umuntu yamugaye ibirenge uhereye kuva mu nda ya nyina, yama aterurwa, bakamushira kw'irembo ry'urusengero ryitwa Ryiza uko bukeye, kugira ngo asege abinjira mu rusengero.

3Uwo abonye Petero na Yohana bagira binjire mu rusengero, arabasega ngo bamuhe.

4Petero amuhanga amaso, bo na Yohana, aramubarira ati: "Ni uturabe. “

5Abashirako umutima agira ngo hari ico bamuha.

6Petero aramubarira ati: "Nta feza n'izahabu mfise, ariko ico mfise ndakiguha; mw'izina rya Yesu Kristo Umunyanazareti, va hasi utambuke. “

7Maze amufata ukuboko kw'i buryo, amukura hasi; ako kanya ibirenge vyiwe n'ingingo zavyo bica birakomera.

8Arasimbasimba arahagarara, atangura gutambuka, yinjirana na bo mu rusengero, atambuka yitera hejuru, ahimbaza Imana.

9Abantu bose babona atambuka ahimbaza Imana,

10bamenya ko ari we yahora yicara kw'irembo ry'urusengero ryitwa Ryiza asegerereza; barumirwa cane, batangazwa n'ibimubayeko.

11Agifashe Petero na Yohana, abantu bose biruka baja aho bari, bakoranira kw'ibaraza ryitwa irya Salomo, batangaye cane.

12Petero abibonye, abaza abo bantu ati: "Yemwe bagabo b'Abisirayeli, ni iki gitumye mutangazwa n'ibi, muduhangiye amaso iki, nk'aho ubushobozi bwacu canke ukwubaha Imana kwacu ari vyo vyaduhaye kumugendesha?

13Imana ya Aburahamu, Isaka na Yakobo, ari yo Mana ya ba sogokuruza, yashimagije Umushumba wayo Yesu, umwe mwebwe mwatanze mukamwihakanira mu maso ya Pilato, amaze kwahukanya urubanza rwo kumurekura.

14Ariko mweho mwihakana Uwera kandi Umugororotsi, musaba ko babarekurira umwicanyi,

© 2007 Bible Society of Burundi.

15wa Mukuru w'ubugingo muramwica; ariko Imana imuzura mu bapfuye, natwe turi
ivyabona vyo gushingira intahe ivyo.

16Kandi uwu, uwo mubona kandi muzi, kuko yizeye izina ry'uwo, iryo zina
ryamuhaye inkomezi. Mbere ukwizera ahawe na we ni kwo kumukirije rwose imbere
yanyu mwese.

17Kandi none, bavukanyi, ndazi yuko mwabikoze mutabizi, n'ababaganza na bo ni
uko.

18Ariko ivyo Imana yavugiye mu kanwa k'abavugishwa na yo bose bitaribwabe, yuko
Kristo wayo azobabazwa, ivyo yabishikije ityo.

19Nuko mwihane, muhindukire, ivyaha vyanyu bihanagurwe, ibihe vyo guhembuka
bibone ingene biza, bivuye mu maso y'Umwami Imana,

20kugira ngo na yo izotume Kristo yabatoranirijwe kera, ni we Yesu.

21Ariko ijuru rikwiye kumwakira, gushitsa ku bihe vyo gusubira guhindura ibintu
vyose bishasha, nk'uko Imana yavuze mu kanwa k'abera bayo yavugisha bose,
uhereye mu ntango. “

22Mose koko yaravuze ati: "Uhoraho Imana azobahagurukiriza uwuvugishwa na we
mu b'i wanyu ameze nkanje; uwo muzomwumvire mu vyo azobabarira vyose. “

23Kandi umuntu wese atazokwumvira uno avugishwa n'Imana, azorandurwa mu
bantu.

24Mbere abavugishwa n'Imana bose, uhereye kuri Samweli n'abamukurikiye, abavuze
bose baramenyekanishije ivyo iyi misi.

25Namwe muri abana b'abavugishwa n'Imana, kandi muri ab'isezerano Imana
yasezeranye na ba sogokuruza banyu, ibarira Aburahamu ati: "Mu ruvyaro rwawe ni
ho imiryango yose yo mw'isi izoherwa umugisha. “

26Ni mwebwe Imana yatanguye gutumako Umushumba wayo imaze kumuzura,
kugira ngo abahe umugisha, abahindure, umuntu wese ave mu bibi vyiwe.

## Igitabo C' Ivyakozwe N'intumwa 4

1Bakivugana n'abantu, abaherezi bazanana aho bari n'umukuru w'abacungera irembo
ry'urusengero, n'Abasadukayo,

2bababajwe cane n'uko bigisha abantu, bababarira yuko ukuzuka kw'abapfuye
kwabonetse kuri Yesu.

3Babashorerako amaboko, babashira mw'ibohero gushitsa mu gitondo, kuko bwari
bugorovye.

4Ariko benshi mu bumvise iryo jambo barizera, igitigiri c'abagabo gishika
nk'ibihumbi bitanu.

© 2007 Bible Society of Burundi.

5Bukeye bw'aho, abashingantahe babo, abakuru n'abahinga b'ivyanditswe bakoranira i Yerusalemu,

6Anasi umuherezi mukuru, Kayafa, Yohana, Alekisandero n'abo umuryango bose w'abaherezi bakuru.

7Babashize hagati, barababaza bati: "Ni ubushobozi ki, canke ni izina riki, vyabateye gukora ivyo? “

8Nuko Petero, yuzuye Mpwemu Yera, arababarira ati: "Yemwe bashingantahe b'abantu n'abakuru,

9uwu musi ko ducunaguzwa ivyo twagiriye neza umuntu yanyogomba, kandi n'icamukijije,

10ni mumenye mwese, n'ubwoko bwose bw'Abisirayeli, yuko ari mw'izina rya Yesu Kristo, Umunyanazareti, uwo mwebwe mwabamvye, Imana ikamuzura mu bapfuye, ko ari ho hatumye uwu muntu ahagarara imbere yanyu, akomeye.

11Uwo ni we buye mwebwe abubatsi mwatituye, kandi ryahindutse irigumya imfuruka.

12Kandi nta wundi agakiza kabonerwamwo, kuko ata rindi zina musi y'ijuru ryahawe abantu dukwiye gukirizwamwo.

13Babonye ugushira amanga kwa Petero na Yohana, kandi babona ko batigishijwe, atari abanyabwenge, baratangara; maze bamenya ko babana na Yesu;

14kandi babonye uwo muntu yakijijwe ahagararanye na bo, babura ico bavuga.

15Barabataramura, maze baja inama

16bati: "Mbega aba bantu tubagire dute? Ko vyamenyekanye mu baba i Yerusalemu bose yuko bakoze ikimenyetso kibaye rurangiranwa, natwe ntidushobora kubihakana;

17ariko ntibarushirize kwamamara mu bantu, tubahahirize, ntibongere kugira umuntu n'umwe babarira muri iryo zina. “

18Babahamagaje, barabihanikiriza ngo ntibihende ngo bavuge canke bigishe mw'izina rya Yesu.

19Petero na Yohana barabishura bati: "Namba ari vyiza mu maso y'Imana kubumvira kubarutisha Imana, ni mubitandukanye;

20kuko tweho tudashobora kureka kuvuga ivyo twabonye n'ivyo twumvise. " “

21Na bo bongeye kubahahiriza, barabarekura, babuze uko bobahana kubwo abantu, kuko bose bahimbaza Imana ku vyabaye.

22Kuko uwo muntu yari arengeje imyaka mirongo ine avutse, uwakozweko ico kimenyetso co kumukiza.

© 2007 Bible Society of Burundi.

23Nuko barekuwe basubira muri bagenzi babo, babiganira ivyo abakuru b'abaherezi n'abakuru bababwiye vyose.

24Na bo bavyumvise bavuga n'ijwi rirenga, babwira Imana n'umutima uhuye bati: " "Databuja, ni wewe waremye ijuru n'isi, n'ikiyaga n'ibirimwo vyose,

25kandi wavugiye mu kanwa ka sogokuruza Dawidi, umusavyi wawe, ubivugisha Mpwemu Yera uti: "Abanyamahanga ni iki kibateye umuvurungano, N'amoko yagiriye ingingo iki ivyo ubusa? “

26Abami bo mw'isi batonze urugamba, N'abakuru bakoraniye hamwe, Kurwanya Uhoraho n'Uwo yarobanuje amavuta.

27Kandi vy'ukuri muri iki gisagara, Herode, bo na Pontiyo Pilato hamwe n'abanyamahanga n'imiryango ya Isirayeli, bakoraniye kurwanya Umushumba wawe yera Yesu, uwo warobanuje amavuta,

28ngo bashitse ivyo ukuboko kwawe n'inama yawe vyari vyaragabiye vyose ko bizoba.

29Kandi none, Mwami, raba agahahirizo kabo, uhe abasavyi bawe kuvuga ijambo ryawe bashize amazinda rwose.

30Ukigoroye ukuboko kwawe gukiza indwara, ibimenyetso n'ibitangaza bikorwe mw'izina ry'Umushumba wawe yera Yesu. " “

31Bahejeje gusenga, aho bakoraniye haratigita, bose buzuzwa Mpwemu Yera, bavuga ijambo ry'Imana bashize amazinda.

32Kandi abizeye umurwi bari bahuje umutima n'inama, kandi nta n'umwe yakimbukira ikintu cose atunze ngo ni iciwe, ariko vyose barabisangira.

33Kandi intumwa zashingira intahe ukuzuka kw'Umwami Yesu ziri n'ubushobozi bwinshi, kandi ubuntu bw'Imana bwinshi buba kuri bo bose.”

34Nta mukene yari muri bo, kuko abari bafise amatongo bose canke inzu babigurisha, bakazana ibiguzi vy'ivyo bagurishije,

35bakabishira imbere y'ibirenge vy'intumwa; maze bakabigabanganya abantu, umuntu wese uko akenye.

36Na Yosefu, uwo intumwa zise Barunaba, risobanurwa ngo Umwana wo guhanura, Umulewi yavukiye i Kupuro,

37yari afise itongo ararigurisha, azana ibiguzi vyaryo, abishira imbere y'ibirenge vy'intumwa.

## Igitabo C’ Ivyakozwe N’intumwa 5

1Kandi hari umugabo yitwa Ananiya, agurisha itongo afatanije n'umugore wiwe Safira,

© 2007 Bible Society of Burundi.

[2]yisigariza ku biguzi vyayo, umugore wiwe abizi, azana ikigabane, agishira imbere y'ibirenge vy'intumwa.

[3]Petero aramubaza ati: "Ananiya, ni iki gitumye Satani yuzuza umutima wawe guhenda Mpwemu Yera, ukisigariza ku biguzi vy'itongo?

[4]Ukiyifise ntiyari iyawe? Kandi umaze kuyigurisha, ibiguzi vyayo ntuba warabikoze uko ugomba? Ni igiki catumye wigira ingingo mu mutima wawe gukora utyo? Si abantu uhenze, Imana ni yo uhenze. “

[5]Ananiya yumvise ayo majambo agwa bukumbi. Abavyumvise bose baterwa n'ubwoba bwinshi.

[6]Imisore iva hasi, iramutekera, iramujana, iramuhamba.

[7]Hahise nk'isaha zitatu, umugore wiwe arinjira, atazi ivyabaye;

[8]Petero aramubaza ati: "Mbarira, mbega itongo mwarigurishije ayo nyene? " Aramwishura ati: "Ego me, ni ayo. “

[9]Petero aramubaza ati: "Ni igiki gitumye muhuza inama kugerageza Mpwemu w'Uhoraho Imana? Ehe ibirenge vy'abahejeje guhamba umugabo wawe biri ku rugi, nawe barakujana. “

[10]Uwo mwanya agwa imbere y'ibirenge vyiwe bukumbi. Ya misore yinjiye isanga amaze guhwera, iramujana, imuhamba i ruhande y'umugabo wiwe.

[11]Ishengero ryose n'abavyumvise bose baterwa n'ubwoba bwinshi.

[12]Ibimenyetso n'ibitangaza vyinshi bikorwa mu bantu n'amaboko y'intumwa. Kandi bose bakoranira mw'ibaraza rya Salomo n'umutima uhuye.

[13]Ariko mu bandi nta muntu yatinyuka kwifatanya na bo, yamara abantu bose barabashimagiza,

[14]barushiriza kwongerwako ishengero ryinshi ry'abagabo n'abagore, abizeye Umwami Yesu;

[15]bituma banaterurira abarwaye ku nzira, babashira mu nderuzo no ku birago, kugira ngo Petero ni yahaca, naho coba igitutu ciwe gishike kuri bamwe.

[16]Hakoranira ishengero rivuye no mu bisagara bihereranye n'i Yerusalemu, bazana abarwaye n'ababababazwa n'impwemu zihumanye, bakizwa uko bangana.

[17]Maze umuherezi mukuru ahagurukana n'abari kumwe na we bose, ni bo muce witwa uwo Abasadukayo, buzura ishari,

[18]bashorera amaboko ku ntumwa, bazishira mu nzu y'ibohero rya bose.

[19]Maze umumarayika w' Umwami Imana ahenga mw'ijoro yugurura imyango y'ibohero, abakurayo, arababwira

© 2007 Bible Society of Burundi.

[20]ati: "Ni mugende, muhagarare mu rusengero, mubarire abantu amajambo yose ya bwa Bugingo. "

[21]Bavyumvise, binjira mu rusengero hari nko mu mutwenzi, barigisha. Maze umuherezi mukuru azanana n'abari kumwe na we, bahamagaza abacamanza, n'abakuru bose b'Abisirayeli, maze batuma mu nzu y'abanyororo kuzana za ntumwa.

[22]Abagendanyi bagiye ntibazisanga mw'ibohero. Baragaruka barababwira

[23]bati: "Inzu y'abanyororo dusanze yugaye ata nkomanzi iriho na mba, n'abarinzi bahagaze ku myango, maze twuguruye ntitwasangamwo umuntu. "

[24]Bumvise ayo majambo umukuru w'abacungera irembo y'urusengero n'abaherezi bakuru bazazanirwa n'ivyabo, n'inkurikizi yavyo.

[25]Haza umuntu arababarira ati: "Erega ba bagabo mwashira mw'ibohero bari mu rusengero bahagaze bigisha abantu. "

[26]Maze uwo mukuru w'abacungera irembo ajana n'abagendanyi, babazana ku neza, kuko batinya abantu, ngo ntibabatere amabuye.

[27]Bamaze kubazana babashira mw'ikoraniro ry'abashingantahe; umuherezi mukuru arababaza

[28]ati: "Mbega ntitwabihanije cane kutigisha muri rya zina? None raba mwujuje Yerusalemu inyigisho zanyu; ico murondera ni ukudushirako amaraso ya wa muntu. "

[29]Maze Petero n'intumwa barabishura bati: "Igikwiye ni ukwumvira Imana kuyirutisha abantu.

[30]Imana ya ba sogokuruza yazuye Yesu, uwo mwebwe mwishe mumumanitse ku giti.

[31]Uwo Imana yaramushize hejuru n'ukuboko kwayo kw'i buryo, ngo abe Umukuru n'Umukiza, ngo ahe Abisirayeli kwihana no guharirwa ivyaha.

[32]Natwe turi ivyabona vyo gushingira intahe ivyo, na Mpwemu Yera na we ni uko, uwo Imana yahaye abayumvira. "

[33]Ariko bo bavyumvise baribwa mu mitima, bashaka kubica.

[34]Maze hahaguruka umwe mw'ikoraniro ry'abashingantahe, w'Umufarisayo yitwa Gamaliyeli, umwigisha w'ivyagezwe, yubahwa n'abantu bose, avuga ko bataramura abo bantu akanya gato.

[35]Maze arababarira ati: "Yemwe bagabo b'Abisirayeli, ni mwirinde mumenye uko mugirira aba bantu;

[36]kuko mu misi ishize Teyuda yadutse yiyita agakomeye, igitigiri c'abantu gishika nk'amajana ane baramukurikira. " Maze aricwa, abamwumvira bose barasabagira, bacika ubusa.

[37]Hanyuma yiwe haduka Yuda Umunyagalilaya, mu misi yo kwandikwa, yikwegera abantu inyuma; na we apfa rubi, n'abamwumvira bose uko bangana barasabagira.

© 2007 Bible Society of Burundi.

38Kandi none ndababwire; ni muzibukire aba bantu, mubarekure; kuko iyi nama n'iki gikorwa ni vyaba biturutse mu bantu, bizosendwa;

39ariko ni vyaba biturutse ku Mana, ntimuzoshobora kubatsinda, ntimuzosange muhaye murwanya Imana.

40Baramwemerera, maze bahamagaje intumwa, barazitonagura, barazihanikiriza ngo ntizizokwigishe mw'izina rya Yesu, maze barazirekura.

41Nuko bava mu maso y'abacamanza, banezerejwe n'uko bemerewe gukurwako urupfasoni ku bw'iryo zina.

42Kandi imisi yose mu rusengero no mu mihana ntibahengeshanya kwigisha no kuvuga ubutumwa bwiza bwa Yesu, ko ari we Kristo.

## Igitabo C' Ivyakozwe N'intumwa 6

1Kandi muri iyo misi, abigishwa bariko baragwira, Abayuda bavuye i Bugiriki bidodombera Abaheburayo kavukire, kuko abapfakazi babo birengagizwa ku ngaburo y'imisi yose.

2Bamwe icumi na babiri bakoranya ishengero ry'abigishwa bati: "Ntibibereye yuko twebwe tureka kwigisha ijambo ry'Imana kubwo kugaburira ivyo ku meza.

3Nuko, bavukanyi, ni murabe muri mwebwe abantu indwi bashimwa, buzuye Mpwemu Yera n'ubwenge, tubashire muri iki gikorwa.

4Ariko tweho tuzoshishikara gusenga no kugabura ijambo ry'Imana. “

5Ayo majambo ishengero ryose rirayashima, batoranya Stefano, umuntu yuzuye ukwizera na Mpwemu Yera, Filipo, Purokoro, Nikanori, Timoni, Parumena na Nikolayo, Umunyantiyokiya yatoye idini y'Abayuda.

6Babashira imbere y'intumwa, kandi bamaze gusenga zibarambikako ibiganza.

7Nuko ijambo ry'Imana riragwira; abigishwa barongerekana cane i Yerusalemu, n'isinzi ry'abaherezi bumvira ukwizera.

8Stefano yari yuzuye ubuntu bw' Imana n'ubushobozi, yakora ibitangaza n'ibimenyetso bikomeye mu bantu.

9Ariko hava hasi abantu bamwe bo mu rusengero rw'Abaliberutino, urwo Abanyakurene, urwo Abanyalekisanderiya, n'urwo Abanyakilikiya n'iyo Abanyasiya, baja impari na Stefano,

10ariko ntibashobora gutsinda ubwenge na Mpwemu bimuvugisha.

11Nuko bahera abagabo bo kuvuga bati: "Twumvise avuga amajambo yo gutyoza Mose n'Imana. “

12Bosha abantu, abakuru n'abahinga b'ivyanditswe baramugira, baramufata, bamujana mw'ikoraniro ry'abashingantahe.

© 2007 Bible Society of Burundi.

13Bahagarika ivyabona vy'ibinyoma, baravuga bati: "Uwu muntu nta ho ahumeka gutuka aha hantu hera n'ivyagezwe;

14kuko twumvise avuga ko Yesu Umunyanazareti azosambura aha hantu, kandi ngo azohindura imigenzo twahawe na Mose. “

15Abicaye mw'ikoraniro ry'abashingantahe bose bamuhanze amaso babona mu maso hiwe, hasa n'aho umumarayika.

## Igitabo C’ Ivyakozwe N’intumwa 7

1Umuherezi mukuru aramubaza ati: "Mbega ivyo ni ko biri? “

2Na we aramwishura ati: "Yemwe bavukanyi kandi ba data, ni mwumve; Imana y'icubahiro yiyeretse sogokuruza Aburahamu, ari i Mesopotamiya, ataraja kugerera i Harani,

3iramubarira iti: 'Va mu gihugu canyu no mu muryango wanyu, uje mu gihugu nzokwereka.’

4Maze ava mu gihugu c'i Bukaludaya, agerera i Harani. Se amaze gupfa, iramwimura, imuzana muri iki gihugu mubamwo ubu.

5Ariko ntiyakimuhayemwo umugabane, naho hoba aho gushinga ikirenge; isezerana kuzokimuha ngo kibe itongo ryiwe n'iryo uruvyaro rwiwe, kandi ataragira umwana. “

6Kandi Imana ivuga itya iti: "Uruvyaro rwawe ruzoba abanyamahanga mu kindi gihugu, bazobagira abaja, babagirire nabi imyaka amajana ane.

7Kandi ihanga rizobagira abaja ni jewe nzoricirako iteka, Imana ni ko yagize iti: "Ariko amaherezo bazovayo, bansengere aha hantu. “

8Maze imuha isezerano ryo guhimburwa igikoba c'ubugabo. Nuko avyara Isaka, amuhimbura igikoba c'ubugabo ku musi ugira umunani; Isaka avyara Yakobo, Yakobo avyara ba sogokuruza bakuru icumi na babiri.

9Ba sogokuruza bagirira Yosefu ishari, baramugurisha ngo ajanwe mu Misiri. Imana ibana na we,

10imukiza mu marushwa yiwe yose, imuha amahirwe n'ubwenge kuri Farawo, umwami wo mu Misiri, amugira icegera ciwe ngo aganze mu Misiri, amuzeza n'urugo rwiwe rwose.

11Ikigoyi gitera mu Misiri hose n'i Kanani, hatera n'amarushwa menshi, kandi ba sogokuruza babura ivyo kurya.

12Maze Yakobo yumvise yuko mu Misiri hari amasumo, atuma ba sogokuruza ubwa mbere.

13Kandi ubugira kabiri Yosefu yibarira abavukanyi biwe, umuryango wa Yosefu umenywa na Farawo.

© 2007 Bible Society of Burundi.

14Yosefu atuma kuzana se Yakobo n'abo mu nzu yabo bose, uko ari mirongo irindwi na batanu.

15Yakobo aramanuka, aja mu Misiri; agwayo, bo na ba sogokuruza.

16Babajana i Shekemu, babahamba mw'isenga Aburahamu yaguze igiciro c'ifeza n'abana ba Hamori i Shekemu.

17Ariko igihe c'isezerano kigira gishike, iryoImana yasezeraniye Aburahamu, abantu baragwira, baba benshi mu Misiri,

18gushitsa aho uwundi mwami yimikiwe mu Misiri atigeze kumenya ivya Yosefu.

19Uwo mwami agirira ubugunge ubwoko bwacu, agirira ba sogokuruza nabi, abategeka guheb'abana babo b'inzoya kugira ngo ntibabeho.

20Muri ico gihe Mose aravuka, yari mwiza cane, bamurerera mu nzu kwa se amezi atatu;

21amaze gutabwa, umukobwa wa Farawo aramutora, amurerera kuba umwana wiwe.

22Mose yigishwa ubwenge bwose bw'Abanyamisiri, agira ubushobozi mu majambo yiwe no mu bikorwa vyiwe.

23Maze ariko aramara imyaka mirongo ine avutse, haza iciyumviro mu mutima wiwe co kugendera abavukanyi b'Abisirayeli.

24Abonye umuntu agiririrwa nabi, aramutabara, ahora iyo mpahazwa, yica wa Munyamisiri.

25Yibwira yuko abo i wabo botahura ko Imana ibakirisha ukuboko kwiwe; ariko ntibabimenya.

26Bukeye bw'aho, asanga abarwana, ageza kubatatura ati: "Yemwe bagabo, muri umuryango umwe, ni iki gitumye mugiriranira nabi? “

27Ariko uwagirira umubanyi wiwe nabi aramusunika, aramubaza ati: "Ni nde yakugize umukuru canke umucamanza wacu?

28Mbega ugomba kunyica, nk'uko ejo wishe wa Munyamisiri? “

29Mose yumvise iryo jambo, arahunga, aba umwimuka mu gihugu c'I Midiyani, avyarirayo abahungu babiri.

30Imyaka mirongo ine ishize, umumarayika amubonekerera mu rubeya rw'umuriro waka mu gisaka c'amahwa mu bugaragwa bwo ku musozi Sinayi.

31Mose abonye ivyo biramutangaza; akivyegera ngo avyihweze, havuga ijwi ry'Uhoraho

32riti: "Ni jewe Mana ya ba sogokuruza bawe, Imana ya Aburahamu, Imana ya Isaka, Imana ya Yakobo. " Mose ahinda agashitsi, ntiyatinyuka kwihweza.

© 2007 Bible Society of Burundi.

33 Uhoraho aramubarira ati: "Kura ibirato mu birenge vyawe, kuko aho hantu uhagaze ari ahera. “

34 Ni ukuri nabonye amarushwa abantu banje bari mu Misiri barimwo, numvise ukuniha kwabo, none manukanywe no kubarokora; kandi rero ni uze ndagutume mu Misiri. “

35 Uwo Mose, umwe banka bati: "Ni nde yakugize umukuru canke umucamanza? ni we Imana yatumye kuba umukuru n'umucunguzi, abihawe n'ukuboko kw'umumarayika yamubonekereye muri ca gisaka.

36 Uwo abakurayo, amaze gukora ibitangaza n'ibimenyetso mu gihugu ca Misiri, no ku Kiyaga Gitukura no mu bugaragwa, imyaka mirongo ine.

37 Uwo Mose ni we yabwiye Abisirayeli ati: "Imana izobahagurukiriza uwuvugishwa na yo mu b'i wanyu, ameze nkanje. “

38 Kandi uwo Mose ni we yari mw'ishengero ryo mu bugaragwa, ari kumwe n'umumarayika yavuganiye na we ku musozi Sinayi, kandi ari kumwe na ba sogokuruza; kandi yaherejwe amajambo y'ubugingo ngo ayaduhe.

39 Ba sogokuruza banse kumwumvira, baramwikunkumura, basubira mu Misiri mu mitima yabo,

40 babwira Aroni bati: "Ni uturonkere imana zo kutuja imbere; kuko umwe Mose yaturongoye adukura mu gihugu ca Misiri, tutazi ico yabaye. “

41 Bironkera igishushanyo c'inka muri iyo misi, ico kigirwamana bakizanira ibimazi, bahimbarwa n'ibikorwa vy'intoke zabo.

42 Ariko Imana iraba hirya, irabaheba ngo basenge ingabo zo kw'ijuru; nk'uko vyanditswe mu gitabo c'abavugishwa n'Imana, ngo Mbega hari ibitungwa bibazwe canke ibimazi mwanshikaniye, Ya myaka uko ari mirongo ine yo mu bugaragwa, yemwe ab'inzu ya Isirayeli?

43 Mwareruye ihema rya Moloki, N'inyenyeri y'ikigirwamana Refani, ari ibishushanyo mwironkeye ngo mubisenge; Nanje nzobambukana hirya y'i Babuloni.

44 Ba sogokuruza bari bafise ihema ry'ibisate vy'amabuye vy'amabwirizwa icumi, hamwe bari mu bugaragwa, nk'uko iyavuganye na Mose yabigeze, yamubwiye kurigereranya n'ikigereranyo yabonye.

45 Iryo, ba sogokuruza barihawe na ba sekuru babo, barishikana ino, Yosuwa ari kumwe na bo, hamwe batsinda amahanga, Imana iyirukana imbere ya ba sogokuruza, gushitsa ku gihe ca Dawidi.

46 Kandi Dawidi aronka amahirwe imbere y'Imana, asaba kwubakira Imana ya Yakobo aho kuba.

47 Ariko Salomo ni we yayubakiye ingoro.

© 2007 Bible Society of Burundi.

48Yamara Iyisumbavyose ntiba mu zubakishijwe amaboko; nk'uko uwavugishijwe n'Imana yavuze

49ati: "Ijuru ni ryo ntebe yanje y'ubwami, Isi na yo ni indava y'ibirenge vyanje; Muzonyubakira inzu ki? ni ko Uhoraho abajije, Canke nzoruhukira ahantu ki?

50Mbega intoke zanje si zo zaremye ivyo vyose?

51Yemwe abadaca bugufi, mwa badadaza imitima mukiziba amatwi, na ntaryo murwanya Mpwemu Yera. Uko ba sogokuruza banyu bakora, ni ko namwe mukora.

52Ni nde mu bavugishijwe n'Imana ba sogokuruza banyu batahamye? Bishe ababanje kumenyekanisha ivyo kuza kwa wa Mugororotsi, none namwe mwaramuguze muramwica.

53Ari mwebwe mwahawe ivyagezwe bizanywe n'abamarayika, ntimwavyitondera. “

54Bavyumvise baribwa mu mitima, bamuhekenyera imisaya.

55Ariko Stefano yuzuye Mpwemu Yera, ahanga amaso mw'ijuru, abona ubwiza bw'Imana, na Yesu ahagaze i buryo bw'Imana.

56Aravuga ati: "Ehe ndabonye ijuru rikingurutse, n'Umwana w'umuntu ahagaze i buryo bw'Imana. “

57Barayogora n'amajwi arenga, biziba amatwi, bamugwirako icarimwe,

58bamuhindira inyuma y'igisagara, bamwicisha amabuye; kandi abamwagirije bari bafashije hasi imitamana yabo imbere y'ibirenge vy'umusore yitwa Sawuli.

59Maze bakiriko baratera Stefano amabuye, arambaza, aravuga ati: "Mwami Yesu, akira ubugingo bwanje. “

60Araheza arapfukama, asemerera n'ijwi rirenga ati: "Mwami, ntubaharureko iki caha. " Amaze kuvuga atyo, aca aracikana. Kandi Sawuli na we yarabishimye ko yicwa.

## Igitabo C’ Ivyakozwe N’intumwa 8

1Bahera kuri uwo musi bahama cane ishengero ry'i Yerusalemu. Bose basabagirira mu ntara z'i Yudaya n'i Samariya, ukuyemwo intumwa gusa.

2Abantu bubaha Imana bahamba Stefano, baramuborogera cane.

3Ariko Sawuli yatikiza ishengero; yinjira mu nzu zose, agakuramwo abagabo n'abagore, akabashira mw'ibohero.

4Ariko abasabagiye bagendagenda bavuga ijambo ry'Imana.

5Na Filipo aramanuka, aja mu gisagara c'i Samariya, abamenyesha ivya Kristo.

6Abantu benshi bashira umutima ku vyo Filipo avuga bashize hamwe, bumvise kandi babonye ibimenyetso akora.

© 2007 Bible Society of Burundi.

7Kuko benshi muri bo bari binjiwemwo n'impwemu zihumanye zabavamwo, ziboroga n'amajwi arenga; kandi n'abari bamugaye n'abacumbagira benshi barakizwa.

8Haba umunezero mwinshi muri ico gisagara.

9Kandi hariho umuntu yitwa Simoni, yahora akora ivyo ubupfumu muri ico gisagara, akumiza ubwoko bw'Abasamariya, akiyita agakomeye.

10Bama bamushizeko umutima bose, uhereye ku boroshe ugashitsa ku bahambaye bati: "Uwu ni we bwa bushobozi bw'Imana bwitwa Ubuhambaye. “

11Ariko icatuma bamushirako umutima ni uko uhereye kera yabumiza n'ubupfumu bwiwe.

12Ariko bizeye ubutumwa bwiza Filipo ababwiye bw'ubwami bw'Imana, n'ubwo izina rya Yesu Kristo, abagabo n'abagore barabatizwa.

13Na simoni na we arizera, kandi amaze kubatizwa yamana na Filipo. Abonye ibimenyetso n'ibitangaza bihambaye vyakorwa, arumirwa.

14Maze intumwa ziri i Yerusalemu zumvise yuko Abasamariya bemeye ijambo ry'Imana, zirungikayo Petero na Yohana,

15na bo bamanutseyo barabasengera ngo bahabwe Mpwemu Yera;

16kuko Mpwemu ataribwamanuke ngo aje no kuri umwe muri bo, bari babatijwe gusa mw'izina ry'Umwami Yesu.

17Maze babarambikako ibiganza, bahabwa Mpwemu Yera.

18Ariko Simoni, abonye yuko abarambitsweko ibiganza vy'intumwa bahabwa Mpwemu Yera, azizanira amahera

19ati: "Nanje ni mumpe ubwo bushobozi, kugira ngo uwo nzorambikako ibiganza azohabwe Mpwemu Yera. “

20Petero aramubwira ati: "Ifeza zawe ziragapfana nawe, kuko ugira ngo ingabire y'Imana woyironkesha amahera.

21Nta n'agahimba ufise, nta n'akagabane kavyo, kuko umutima wawe udatunganye imbere y'Imana.

22Nuko wihane ubwo bubi bwawe, usenge Umwami Imana, namba kumbure ivyo wiyumviriye mu mutima wawe wobiharirwa.

23Kuko mbona yuko uri mw'ibamba ry'umururazi no mu ngoyi zo kugabitanya. “

24Simoni aramwishura ati: "Munsengere ku Mwami Imana, ivyo muvuze ntihagire ikimbako. “

25Na bo bamaze gushinga intahe, no kuvuga ijambo ry'Umwami Yesu, basubira i Yerusalemu, bagenda baravuga ubutumwa bwiza mu mihana myinshi y'Abasamariya

© 2007 Bible Society of Burundi.

26Maze umumarayika w'Umwami Imana abarira Filipo ati: " "Va hasi uje mu bumanuko, ushike ku nzira imanuka iva i Yerusalemu ikaja i Gaza; imwe yo mu bugaragwa. “

27Avahasi, aragenda. Haza Umunyetiyopiya, inkone y'ububasha bwinshi yakorera Kanidake, umwamikazi w'Abanyetiyopiya, ni yo yazezwa itunga ryiwe ryose, yari yagiye i Yerusalemu gusenga.

28Yahindukiye yicaye mu mukogote wiwe ukwegwa n'amafarasi, asoma muri Yesaya yavugishwa n'Imana.

29Mpwemu abarira Filipo ati: "Ni wegere uriya mukogote, ugendane na wo. “

30Filipo yirukirayo, yumva asoma muri Yesaya yavugishwa n'Imana; aramubaza ati: "Ivyo usoma urabitahuye? “

31Na we ati: "Nobishobora nte, ntabonye uwubindongoramwo? " Yinginga Filipo ngo yurire bicarane.

32Igice co mu vyanditswe yasoma cari iki, ngo Yajanywe nk'intama bajana mw'ibagiro, Nk'uko umwagazi w'intama utekerereza imbere y'uwuyikata ubwoya Ni ko atakuyeko umunwa.

33Hamwe yacishwa bugufi nta numwe yamuciriye urwo ukuri, Ni nde azoshobora kudonda ivyo uruvyaro rwiwe? Kuko ubugingo bwiwe bukuwe mw'isi.

34Iyo nkone ibaza Filipo iti: "Ndakubaza, uwavugishwa n' Imana yavuze ayo majambo kuri nde? Ni we yayivuzeko, canke yayavuze ku wundi? “

35Filipo ateranura akanwa, atangurira kuri ivyo vyanditswe, amubwira ubutumwa bwiza bwa Yesu.

36Bakigenda mu nzira, bashika ahari amazi; iyo nkone iramubaza iti: "Ehe amazi; ikimbuza kubatizwa ni igiki? "

[ 37Filipo arayishura ati: "Namba wizeye mu mutima wawe wose birashoboka. " Na yo iti: "Nizeye Yesu Kristo ko ari Umwana w'Imana. " ]

38Ivuga ko bahagarika umukogote, baramanukana baja mu mazi bompi, Filipo n'iyo nkone, arayibatiza.

39Bavuye mu mazi, Mpwemu w'Uhoraho Imana ajana Filipo, iyo nkone ntiyasubira kumubona, kuko yashishikaye kugenda inezerewe.

40Ariko Filipo abonekera muri Azoto, ahahita avuga ubutumwa bwiza mu bisagara vyose, kugeza aho yashikiye i Kayisariya.

## Igitabo C’ Ivyakozwe N’intumwa 9

1Ariko Sawuli, akigenda afuhagira, afitiye abigishwa b'Umwami imihigo n'ubwicanyi, aja ku muherezi mukuru,

© 2007 Bible Society of Burundi.

2amusaba amakete yo guha abo nsengero z'Abayuda z'i Damasiko, kugira ngo ni yabona abantu bakurikira Inzira ya Yesu, ari abagabo canke abagore, abajane i Yerusalemu mw'ibohero.

3Maze ariko aragenda, agira ashike i Damasiko, haza umuco giturumbuka, uvuye mw'ijuru, umukayanganira irya n'ino.

4Yikubita hasi, yumva ijwi rimubaza riti: "Sawuli, Sawuli, umpigira iki? “

5Aramubaza ati: "Uri nde ga Mwami? " Na we ati: "Ni jewe Yesu, uwo uriko urahiga;

6ariko va hasi, ushike mu gisagara, uzobarirwa ivyo ukwiye gukora. “

7Abagabo bajanye na we bahagarara badakoma, kuko bumvise ijwi, ata muntu babona.

8Sawuli aravyuka, ava hasi, maze akanuye amaso ntiyagira ico abona. Bamufata ukuboko, bamushikana i Damasiko.

9Amarayo gatatu, atabona, ata co arya, ata co anywa.

10I Damasiko hari umwigishwa yitwa Ananiya. Umwami Yesu aramwiyereka, aramuhamagara ati: "Ananiya. " Na we ati: "Sabwe, Mwami. “

11Umwami aramubarira ati: "Va hasi, uje mu nzira yitwa Iyigororotse, ubarizeyo mu rugo kwa Yuda umuntu yitwa Sawuli w'i Taruso, kuko ariko arasenga.

12Kandi yabonye umuntu yitwa Ananiya yinjira aho ari, amurambikako ibiganza, kugira ngo ahumuke. “

13Ananiya aramwishura ati: "Mwami, uwo mugabo ko numvise benshi bavuga ivyiwe, vy'inabi nyinshi yagirira abera bawe i Yerusalemu;

14kandi n'ino ahafise ububasha abuhawe n'abaherezi bakuru, bwo kuboha abambaza izina ryawe bose. “

15Umwami aramwishura ati: "Pfa kugenda, kuko uwo muntu ari ikintu nitoranirije, ngo ajane izina ryanje imbere y'abanyamahanga, abami n'Abisirayeli.

16Nanje nzomwereka imibabaro uko ingana azoba akwiye kubabazwa ahorwa izina ryanje. “

17Ananiya aragenda, yinjira mu nzu, amurambikako ibiganza, aramubwira ati: "Sawuli, muvukanyi wanje, Umwami arantumye, ni we Yesu yakubonekereye mu nzira wazananye, ngo uhumuke, wuzuzwe Mpwemu Yera. “

18Uwo mwanya ibisa n'ibikaragashi bimuva ku maso, arahumuka, ava hasi, arabatizwa;

19maze ararya, intege ziragaruka. Amarana imisi n'abigishwa b'i Damasiko;

20aca aherako avuga mu nsengero z'Abayuda ivya Yesu, yuko ari Umwana w'Imana.

© 2007 Bible Society of Burundi.

21Abamwumvise bose barumirwa bati: "Mbega uwu si we yatikije abambaza iryo zina i Yerusalemu? Kandi ni co cari kimuzanye n'ino, kugira ngo abashire abaherezi bakuru bari baboshwe. “

22Ariko Sawuli arushiriza kugira ubushobozi, atsinda Abayuda baba i Damasiko, abereka yuko Yesu ari we Kristo.

23Hashize imisi myinshi, Abayuda baja inama yo kumwica.

24Maze Sawuli amenya inama yabo. Bamutegera ku marembo ku murango no mw'ijoro kugira ngo bamwice.

25Maze abigishwa biwe bamujana mw'ijoro, bamucisha ku ruhome rw'amabuye, bamwururukiriza mu giseke.

26Ashitse i Yerusalemu, agerageza kwifatanya n'abigishwa. Bose baramutinya, ntibemera ko ari umwigishwa.

27Maze Barunaba aramwakira, amushira intumwa, aziganira ingene yaboneye Umwami Yesu mu nzira, n'ingene yavuganye na we, kandi n'ingene yavuze ashize amanga mw'izina rya Yesu i Damasiko.

28Aba kumwe na bo uko bukeye uko bwije i Yerusalemu,

29avuga ashize amanga mw'izina ry'Umwami Yesu; yaravuga aharira n'Abayuda bavuye i Bugiriki; na bo barondera ingene bomwica.

30Ariko abavukanyi babimenye, bamumanukana i Kayisariya, bamurungika i Taruso. “

31Nuko ishengero ryose ryari hose i Yudaya; Galilaya n'i Samariya rigira amahoro, rirahangama. Kandi rigenda ryubaha Umwami Yesu, rihagarikiwe na Mpwemu Yera, riragwira.

32Nuko Petero agendagenda hose, amanuka no ku bera baba i Luda,

33asangayo umuntu yitwa Ayineya, yari amaze imyaka munani avundira mu buriri, kuko yari yaramugaye.

34Petero aramubwira ati: " "Ayineya, Yesu Kristo aragukijije; vyuka, wizingire ikirago. " " Aca avyuka ako kanya.

35Ababa i Luda n'i Saroni bose bamubonye bahindukirira Umwami Yesu.

36Kandi i Yopa hari umwigishwa yitwa Tabita, risobanurwa ngo Doruka. Uwo mugore yari n'ibikorwa vyiza vyinshi, n'ubuntu bwinshi yagira.

37Muri iyo misi ararwara, arapfa. Bamaze kwuhagira ikiziga, bagishira mu nzu yo hejuru.

38Kandi kuko i Luda hari hafi y'i Yopa, abigishwa, bumvise ko Petero ari yo ari, bamutumako abantu babiri, bamwinginga bati: " "Ntutebe kudushikira. “

© 2007 Bible Society of Burundi.

39Petero arahaguruka, ajana na bo. Ashitseyo bamujana muri ya gorofa, abapfakazi bose bahagarara i ruhande yiwe barira, berekana amakanzu n'imitamana Doruka yajishe akiri muri bo.

40Petero arabataramura bose, arapfukama, arasenga; maze ahindukirira umuvyimba ati: "Tabita, vyuka. " Arakanura; maze abonye Petero, aravyuka, aricara.

41Amufata ukuboko, aramuhagarika. Maze ahamagara abera n'abapfakazi, amubaha ari muzima.

42Bimenyekana i Yopa hose, benshi bizera Umwami Yesu.

43Maze amara imisi myinshi i Yopa, kwa Simoni umuhinguzi w'insato.

## Igitabo C' Ivyakozwe N'intumwa 10

1I Kayisariya hari umuntu yitwa Koruneliyo, intwazangabo z'abasoda ijana wo mu ngabo zitwa Abanyetaliya.

2Yari umuntu yubaha Imana akayitinyana n'abo mu nzu yiwe bose, yarafasha cane abagowe, agasenga Imana ubudasiba.

3Abona yeretswe imbonankubone, umumarayika w'Imana yinjiye i we hari nk'isaha icenda z'umurango, aramuhamagara ati: "Koruneliyo. “

4Na we amukanurira amaso, afise ubwoba, aramubaza ati: "Ni iki ga Mwami? " Aramwishura ati: "Ugusenga kwawe n'ubuntu bwawe vyaduze biba icibutso imbere y'Imana.

5None rero tuma abantu i Yopa, utumeko umuntu yitwa Simoni, ari we Petero;

6yatse indaro kwa Simoni umubamvyi w'insato, urugo rwiwe ruri i ruhande y'ikiyaga. " “

7Umumarayika vyavugana amaze kugenda, Koroneliyo ahamagara babiri bo mu bakozi biwe, n'umusoda yubaha Imana wo mu bamugendanira.

8Ahejeje kubiganira vyose, abatuma i Yopa.

9Bukeye bw'aho, bakigenda, bari hafi gushika mu gisagara, Petero yurira hejuru mw'igorofa gusenga, hari nk'isaha zitandatu.

10Yumva arashonje, agomba kurya. Bakibirondera, amera nk'uwurota. “

11Abona ijuru ryugurutse, maze hamanuka ikintu kimeze nk'uruhuzu runiniya, rufashwe ku mitwe ine, kija hasi,

12harimwo ubwoko bwose bw'ibigenza amaguru ane, ibikwega inda hasi vyo kw'isi n'ibiguruka vyo mu kirere.

13Haza ijwi, riramubarira riti: "Va hasi, Petero, ubage, urye. “

14Petero ati: "Oyaye, Mwami, kuko ntigeze ndya ikizira canke igihumanya. “

© 2007 Bible Society of Burundi.

15Iryo jwi risubira kuza ubugira kabiri, riramubarira riti: "Ivyo Imana ihumanuye, reka kuvyita ibizira. “

16Biba bityo gatatu, ico kintu gica gisubizwa mw'ijuru.

17Petero akizazaniwe mu mutima n'ivyo abonye yeretswe ivyo ari vyo, abantu batumwe na Koruneliyo, bahejeje kubaza urugo rwa Simoni, bahagarara kw'irembo,

18barahamagara, babaza yuko Simoni ari we Petero ari ho yatse indaro.

19Petero aciyumvira ivyo yeretswe, Mpwemu aramubarira ati: "Hari abantu batatu bariko barakurondera.

20None va hasi, wururuke ujane na bo ata co ukekeranya, kuko ari jewe ndabatumye. “

21Petero arururuka, asanga abo bantu aho bari, arababarira ati: "Ni jewe uwo murondera. Mbega mugenzwa ni iki? “

22Baramwishura bati: "Koruneliyo, intwazangabo z'abasoda ijana, umuntu agororoka yubaha Imana, ashimwa n'ubwoko bwose bw'Abayuda, yabariwe n'umumarayika yera kugutumako, ngo uze i we, yumve amajambo yawe. " “

23Maze arabinjiza, abaha indaro. Bukeye bw'aho, Petero arikora, avanayo na bo, n'abavukanyi bamwe b'i Yopa bajana na we.

24Bukeye bw'aho bashika i Kayisariya, Koruneliyo yari abiteze, yakoranije incuti ziwe n'abakunzi bo ku mutima.

25Petero agira yinjire, Koruneliyo aramusanganira, yikubita imbere y'ibirenge vyiwe, aramupfukamira.

26Maze Petero amukura hasi ati: " "Va hasi, nanje ndi umuntu nkawe. “

27Bakivugana, arinjira asanga abakoraniyeho benshi,

28arababwira ati: "Ubwanyu murazi yuko kizira ko umuntu w'Umuyuda yifatanya n'uwo ubundi bwoko, canke ko amugendera; ariko jeho, Imana yanyeretse yuko hatogira umuntu nita ikizira canke igihumanya.

29Ni co catumye nza, ntarinze guhakana, ntumweko. None rero ndabaza ico mwantumiyeko ico ari co. “

30Koruneliyo ati: "Hashize imisi ine, nka bugingo ubu, nariko ndasenga ari isaha icenda, ndi mu nzu yanje; maze umuntu ahagarara imbere yanje, yambaye impuzu ikayangana,

31arambwira ati: 'Koruneliyo, ugusenga kwawe kwarumviswe, n'ubuntu bwawe bwibutswe imbere y'Imana.’

32Nuko tuma i Yopa, utumeko Simoni ari we Petero. Yatse indaro mu rugo kwa Simoni umuhinguzi w'insato, i ruhande y'ikiyaga.

© 2007 Bible Society of Burundi.

33Uwo mwanya nca ndagutumako rero, nawe urayobotse ko uje. None rero twese turi hano imbere y'Imana, kwumva ivyo Umwami Imana yakugeze kutubwira vyose. “

34Petero yanzika kuvuga ati: "Ni ukuri ni ho nkimenya yuko Imana itarobanura abantu ku butoni,

35ariko mu mahanga yose uwubaha, agakora ivyo ukugororoka, iramwemera.

36Ijambo Imana yatumye ku Bisirayeli, ivugisha Yesu Kristo ubutumwa bwiza bw'amahoro, ni we Mwami wa bose;

37iryo jambo mwebwe murarizi, ryamamaye i Yudaya hose, ritanguriye i Galilaya, hanyuma y'umubatizo uwo Yohana yigishije;

38rivuga ivya Yesu Umunyanazareti, ingene Imana yamusutseko Mpwemu Yera n'ubushobozi, akagenda agirira abantu neza, agakiza abo bose wa mugarariji atwaza amanyama, kuko Imana yari kumwe na we. “

39Natwe turi ivyabona vyo gushingira intahe ivyo umwe bishe, bamumanitse ku giti yakoze vyose mu gihugu c'Abayuda bo n'i Yerusalemu.

40Uwo, Imana iramuzura ku musi ugira gatatu, imuha guserurwa ahibonekeza,

41si imbere y'abantu bose, ariko imbere y'ivyabona vyatoranijwe n'Imana ivyo bitarabaho, ni twebwe, abasangira na we, turya kandi tunywa, amaze kuzuka mu bapfuye.

42Atugera kumenyesha abantu no gushinga intahe ko ari we Imana yashinze kuba Umucamanza w'abariho n'abapfuye.

43Abavugishwa n'Imana bose bamushingiye intahe, bavuga yuko uwumwizera wese azoharirwa ivyaha ku bwo izina ryiwe.

44Petero akivuga ayo majambo, Mpwemu Yera aramanuka, aja ku bariko barumva iryo jambo bose.

45Abizeye bo mu bahimbuwe igikoba c'ubugabo barumirwa, abazananye na Petero uko bangana, kuko n'abanyamahanga na bo basutsweko ingabire, ari yo Mpwemu Yera.

46Kuko bumvise bavuga izindi ndimi, bahimbaza Imana. Maze Petero arababaza

47ati: "Mbega hari uwoshobora kwima amazi abahawe Mpwemu Yera nkatwe, ngo ntibabatizwe? “

48Avuga ko babatizwa mw'izina rya Yesu Kristo. Baca baramwinginga ngo amareyo imisi.

## Igitabo C’ Ivyakozwe N’intumwa 11

1Intumwa n'abavukanyi biwe bari i Yudaya bumva yuko abanyamahanga na bo bemeye ijambo ry'Imana.

© 2007 Bible Society of Burundi.

2Maze Petero aduze i Yerusalemu, abo mu bahimbuwe igikoba c'ubugabo baramutonganya

3bati: "Ko winjiriye abatahimbuwe igikoba c'ubugabo, ugasangira na bo ! “

4Maze Petero atangura kubasobanurira uko bikurikirana

5ati: "Nari mu gisagara c'i Yopa, ndiko ndasenga, mbona neretswe nko mu nzozi ikintu kimanuka kivuye mw'ijuru, kimeze nk'uruhuzu runiniya rufashwe ku mitwe ine, kiza aho ndi.

6Ndagihanga amaso, ndacitegereza, mbonamwo ibigenza amaguru ane vyo kw'isi, ibikoko vyo mw'ishamba, ibikwega inda hasi n'ibiguruka vyo mu kirere.

7Kandi numva ijwi rimbarira riti: 'Va hasi, Petero, ubage urye.’

8Nanje nti: 'Oyaye, Mwami, kuko ata kizira canke igihumanya cigeze kija mu kanwa kanje.’

9Maze ijwi rimbarira ubugira kabiri rivuye mw'ijuru riti: 'Ivyo Imana ihumanuye, reka kuvyita ibizira.’

10Biba bityo gatatu, biraduzwa vyose, bisubizwa mw'ijuru.

11Uwo mwanya abagabo batatu bavuye i Kayisariya, bantumweko, bahagarara imbere y'inzu turimwo.

12Mpwemu ambarira kujana na bo, ata tandukaniro. Kandi n'abo bavukanyi, uko ari batandatu, turajana, twinjira mu nzu y'uwo mugabo.

13Atwiganira ingene yabonye umumarayika mu nzu yiwe, ahagaze amubarira ati: 'Tuma i Yopa, utumeko Simoni ari we Petero,

14azokubarira amajambo yo kugukizanya n'abo mu nzu yawe bose.’

15Ngitanguye kuvuga, Mpwemu Yera arabamanukira, nk'uko yatumanukiyeko ubwa mbere. “

16Nibuka rya jambo ry'Umwami Yesu, uko yavuze ati: "Yohana yabatirishije amazi, ariko mweho muzobatizwa na Mpwemu Yera. “

17None ko Imana yabahaye ingabire imwe n'iyo natwe twahawe hamwe twizera Umwami Yesu Kristo, jewe ndi igiki gishobora gutangira Imana?

18Bumvise ivyo barihorera, bahimbaza Imana bati: "Noneho rero Imana ihaye n'abanyamahanga kwihana ngo baronke ubugingo. “

19Nuko abasabagijwe n'amarushwa yabaye kubwo ivya Stefano baragenda, bashika i Foyinike, i Kupuro no muri Antiyokiya, ata bandi babarira ijambo ry'Imana atari Abayuda bonyene.

© 2007 Bible Society of Burundi.

[20]Ariko hari bamwe muri bo b'abagabo bavuye i Kupuro n'i Kurene bashitse muri Antiyokiya babarira n'Abagiriki na bo, bababwira ubutumwa bwiza bw'Umwami Yesu.

[21]Ukuboko kw'Umwami kwari kumwe na bo, abantu benshi barizera, bahindukirira Umwami.

[22]Inkuru yabo ishika mu matwi y'ishengero ry'i Yerusalemu, batuma Barunaba ngo ashirwe ashitse muri Antiyokiya.

[23]Na we amaze gushikayo, abonye ubuntu bw'Imana, biramunezereza, arabahanura bose ngo bafate ingingo mu mitima yo kwifatanya ubutakivana n'Umwami Yesu.

[24]Kuko yari imico myiza, yuzuye Mpwemu Yera n'ukwizera. Abantu benshi bagwiririana ku Mwami Yesu.

[25]Avayo, aja i Taruso kurondera Sawuli,

[26]amubonye, amujana muri Antiyokiya. Bamarayo umwaka wose, bakorana n'ishengero, bigisha abantu benshi, kandi muri Antiyokiya ni ho abigishwa batanguriye kwitwa Abakristo.

[27]Muri iyo misi, abavugishwa n'Imana bava i Yerusalemu baja muri Antiyokiya.

[28]Umwe muri bo yitwa Agabo ava hasi abamenyesha, avugishijwe na Mpwemu yuko ikigoyi cinshi kizotera mw'isi yose. Ico yavuga ni kimwe catera ku butware bwa Kilawudiyo.

[29]Maze abigishwa, umuntu wese nk'uko atunze, bashinga kurungikira abavukanyi babo baba i Yudaya ivyo kubatabara.

[30]Babigenza batyo, babirungikira abakuru, bijanye Barunaba na Sawuli.

## Igitabo C' Ivyakozwe N'intumwa 12

[1]Maze nko muri ico gihe umwami Herode ata mu maboko bamwe bo mw'ishengero ngo abagirire nabi.

[2]Yicisha inkota Yakobo mwene nyina wa Yohana.

[3]Maze abonye ko bihimbaye Abayuda, ariyongeza, afata na Petero. Hari mu misi y'imitsima itambiwe.

[4]Amaze kumufata, amushira mw'ibohero, amuha abasoda icumi na batandatu kumurinda ari banebane, agira ngo azomushikirize abantu, Pasika iheze.

[5]Nuko Petero arindirwa mw'ibohero. Ariko abo ishengero baramusengera, batakambira Imana bakobeje.

[6]Ku musi Herode bwaca amubashikiriza, muri iryo joro Petero yari asinziriye ari hagati y'abasoda babiri, aboheshejwe iminyororo ibiri, abateramyi bari ku rugi barinda inzu y'ibohero.

© 2007 Bible Society of Burundi.

7Maze umumarayika w'Umwami Imana amuhagarara i ruhande, umuco ubonesha mu nzu. Akoma Petero mu mbavu, aramukangura ati: "Vyuka ningoga. " Iminyororo imuva ku maboko, irakoroka.

8Umumarayika aramubarira ati: "Kenyera, wambare ibirato vyawe. " Abigenza atyo. Kandi aramubarira ati: "Izingireko umutamana wawe, unkurikire. “

9Arasohoka, aramukurikira, yamara ntiyamenya ivyo umumarayika akoze ko ari ivyo ukuri, ariko agira ngo abonye ivyo yeretswe nko mu nzozi.

10Baciye ku bateramyi ba mbere no ku ba kabiri, bashika kw'irembo ryugajwe umwango w'icuma, rija mu gisagara. Urabiyugururira ubwawo, barenga irembo baca mu nzira imwe, uwo mwanya umumarayika aca amusiga hano.

11Akenge kagarutse, Petero aribwira ati: "Noneho ndamenye vy'ukuri yuko Umwami yatumye umumarayika wiwe, akankiza ukuboko kwa Herode, bo n'ivyo ubwoko bw'Abayuda bwari buroreye vyose. “

12Amaze kuvyiyumvira, aja kwa Mariya, nyina wa Yohana ari we Mariko, aho benshi bari bakoraniye benshi, bariko barasenga.

13Petero akomanga ku rugi rw'irembo, umukobwa w'umushumba yitwa Rode aja kwumvira.

14Amenye ijwi rya Petero akanyamuneza kamubuza kwugurura, arirukanga arinjira, ababarira yuko Petero ahagaze kw'irembo.

15Baramwishura bati: "Urasara. " Na we avuga ashimitse ko ari ivyo ukuri. Bati: "Ni umumarayika wiwe. “

16Ariko Petero ashishikara gukomanga. Buguruye baramubona, barumirwa.

17Arabamama, abiganira uko Umwami Imana yamukuye mw'ibohero, arababwira ati: "Ivyo mubibarire Yakobo n'abavukanyi bandi. " Arahava, aja ahandi.

18Ijoro rikeye, havyuka imivurungano itari mike mu basoda, kuko bazazaniwe ukuntu Petero yabaye.

19Herode amurondeye amubuze, acunaguza abateramyi, avuga ko babajana kubica. Maze ava i Yudaya amanuka i Kayisariya, agumayo.

20Maze ashamirana n'abo muri Tiro n'i Sidoni, na bo bahuza inama, bamujako, bahongera Bulasito, umukuru w'abasasira umwami, basaba impore, kuko igihugu cabo casuma mu gihugu c'uwo mwami.

21Nuko ku musi washinzwe, Herode yambara impuzu z'ubwami, avyagira ku ntebe y'icubahiro, abacurira amajambo.

22Abantu barasemerera bati: "Ni ijwi ry'imana, si iryoumuntu. “

23Uwo mwanya umumarayika w'Umwami Imana aramukubita, kuko adahaye Imana Rurema icubahiro, aturika inyo, aracikana.

© 2007 Bible Society of Burundi.

24Ariko ijambo ry'Imana riragwira, riramenyekana.

25Kandi Barunaba na Sawuli bava i Yerusalemu, basubira inyuma, bashikirije ivyagabuwe, bajana Yohana, ari we Mariko.

## Igitabo C' Ivyakozwe N'intumwa 13

1Kandi muri Antiyokiya, mw'ishengero ryaho, hari abavugishwa n'Imana n'abigisha; umwe ni Barunaba na Simeyoni ari we Nigeru, na Lukiyosi Umunyakurene, na Manayeni yarerewe hamwe n'umwami Herode, hariho na Sawuli.

2Bariko barasenga Umwami Imana bisonzesheje, Mpwemu Yera aravuga ati: "Ni mundobanurire Barunaba na Sawuli bankorere igikorwa nabahamagariye. " "

3Nuko bisonzesheje, basenze, babarambitseko ibiganza, barabarungika.

4Nuko bavuyeyo batumwe na Mpwemu Yera bamanuka i Seleyukiya. Bavayo bari mu bwato bafata i Kupuro.

5Maze bashitse i Salamini, bavuga ijambo ry'Imana mu nsengero z'Abayuda. Kandi bari bafise Yohana agenda arabakorera.

6Bararamiriza baca muri ico kizinga cose, bashika i Pafo, basangayo umugabo w'umukinzi, umuraguzi w'ibinyoma, yari Umuyuda, izina ryiwe ni Bari-Yesu;

7yagendanira Serugiyo Pahulo, icegera ca Kayisari, umuntu w'ubwenge. Uwo ahamagaza Barunaba na Sawuli, ashaka kwumva ijambo ry'Imana.

8Ariko Eluma, uwo mukinzi (izina ryiwe ni ko risobanurwa), arabahaririza, ashaka guhuvya ico cegera ngo nticizere.

9Ariko Sawuli ari we Pahulo, yuzuye Mpwemu Yera, amuhanga amasso

10ati: " "Wewe wuzuye ubugunge bwose n'ububi bwose, wa mwana w'Umurwanizi we, wa mwansi w'ivyo kugororoka vyose, ntuzoreka kugoreka inzira z'Umwami Imana zigororotse? "

11Nuko raba, ukuboko kw'Umwami Imana kuraguhanamiye, ugira uhume, umare imisi utabona izuba. " Ako kanya igipfungu n'umwiza bimwubikizako, agenda azimagirika arondera uwo kumufata ukuboko.

12Ico cegera kibonye ibibaye kirizera, gitangajwe n'ivyo cigishijwe vy'Umwami Yesu.

13Maze Pahulo n'abari kumwe na we bava i Pafo bari mu bwato, bafata i Peruga muri Pamfiliya. Yohana abasigayo, asubira i Yerusalemu.

14Ariko bo bava i Peruga, bararamiriza, bashika muri Antiyokiya h'i Pisidiya; ku musi w'isabato binjira mu rusengero rw'Abayuda, baricara.

15Isomwa ry'ivyagezwe n'ivyo abavugishwa n'Imana riheze, abakuru b'urusengero rw'Abayuda batuma kuri bo bati: " "Bavukanyi, ni mwaba mufise ijambo ryo guhanura abantu, ni murivuge. "

© 2007 Bible Society of Burundi.

16Pahulo ava hasi, arabamama, arababarira ati: "Yemwe bagabo b'Abisirayeli, namwe abubaha Imana, ni mwumve. “

17Imana y'ubu bwoko bw'Abisirayeli yatoranije ba sogokuruza, kandi ishira abantu hejuru hamwe bari abanyamahanga mu gihugu ca Misiri, ikabakuzayo ukuboko gukomeye.

18Yihanganira ingeso zabo nk'imyaka mirongo ine mu bugaragwa.

19Imaze guhonya amahanga indwi mu gihugu c'i Kanani, ibegurira ico gihugu cabo kuba inyegu yabo. Maze nk'imyaka amajana ane na mirongo itanu ishize,

20ibaha abacamanza, gushitsa ku wavugishwa n'Imana Samweli.

21Hanyuma bayisaba umwami, Imana ibaha Sawuli umwana wa Kishi, umugabo wo mu muryango wa Benyamini, amara ku butware imyaka mirongo ine.

22Imukuye, ibahagurukiriza Dawidi kuba umwami wabo, imushingira intahe iti: "Ndabonye Dawidi umwana wa Isayi umuntu ameze nk'uko umutima wanje ugomba, azokora ivyo ngomba vyose.

23Mu ruvyaro rw'uwo, nk'uko Imana yasezeranye, yazaniye Abisirayeli Umukiza, ni we Yesu.

24Ataraza, Yohana yari yigishije ubwoko bwose bw'Abisirayeli ukubatizwa kwo kwihana. “

25Ariko Yohana ariko arasozera urugendo rwiwe, arababaza ati: "Mbega mwiyumvira ko ndi nde? " Jewe sindi we. Mugabo hari uwuzoza mu nyuma yanje, kandi jewe ntibimbereye no gupfundurura ibirato vyo mu birenge vyiwe.

26Bagabo bavukanyi, bana bo mu muryango wa Aburahamu, namwe abubaha Imana, ijambo ry'ako gakiza ni twebwe ryatumweko.

27Kuko ababa i Yerusalemu n'abakuru babo batamumenye, canke amajambo y'abavugishwa n' Imana asomwa ukw'isabato itashe, ni co catumye bashitsa ivyo bavugishijwe, hamwe bamutsindisha.

28Kandi naho babuze inyanduruko yo kumwicisha, basaba Pilato ko amwica.

29Bamaze gushitsa ivyo yandikiwe vyose, bamumanura ku giti, bamushira mu mva.

30Ariko Imana iramuzura mu bapfuye.

31Imisi myinshi abonekera abari baraduganye na we ava i Galilaya aja i Yerusalemu, abo ni bo bamushingira intahe ubu imbere y'abantu.

32Natwe turababwira ubutumwa bwiza bw'ivyasezeraniwe ba sogokuruza,

33yuko Imana yabishikije kuri twebwe abana babo, hamwe yazura Yesu. Kandi ni ko vyanditswe muri Zaburi ya kabiri, ngo uri Uburа bwanje, uwu musi ndakuvyaye.

© 2007 Bible Society of Burundi.

34 Kandi kuko yamuzuye mu bapfuye atazosubira mw'iborero, yavuze itya iti: "Nzobaha imigisha yera ya Dawidi itazovaho. “

35 No muri Zaburi yindi yavuze, ngo ntuzotanga Uwera wawe ngo azobore.

36 Yamara Dawidi mu gihe ciwe amaze gukora ivyo Imana igomba, arasinzira, arapfa, arabora.

37 Ariko uwo Imana yazuye nta ho yigeze abora.

38 Nuko bagabo bavukanyi, ni mumenye ko muri uwo ari ho mubwirirwa ivyo uguharirwa ivyaha;

39 kandi ni we ahindura intungane uwumwizera wese kuri vyose, ivyo mutashoboye guhindurwa intungane n'ivyagezwe vya Mose.

40 Nuko mwirinde, ivyavuzwe n'abavugishwa n'Imana ntibibashikeko,

41 ngo raba mwa banyagakengere, mutangare, muzimangane, Kuko ngira nkore igikorwa mu gihe canyu, Igikorwa mutazoruha mwemera, naho umuntu yokibasobanurira.

42 Bariko barasohoka, barabinginga ngo ayo majambo azovugwe no kw'isabato izoza.

43 Abari mu rusengero rw'Abayuda bamaze gusabagira, benshi mu Bayuda bo n'abatoye idini yabo bakubaha Imana, bakurikira Pahulo na Barunaba; na bo bayaga na bo, barabahanura ngo bashishikare kuguma mu buntu bw' Imana.

44 Kw'isabato ikurikira iyo, hakorana nk'abo mu gisagara bose kwumva ijambo ry'Imana.

45 Ariko Abayuda babonye ishengero ryinshi, buzura ishari, bahakana ivyo Pahulo avuze, barabicokora.

46 Pahulo na Barunaba bavuga bashize amazinda bati: "Vyari bibereye kw'ijambo ry'Imana ribanza kubwirwa mwebwe; none ko murishibuye, mukicira urubanza uko mutabereye ubugingo budashira, ehe-e duhindukiriye abanyamahanga. “

47 Kuko Umwami Imana ari ko yatubariye ati: "Ndagushizeho ngo ube umuco w'amahanga, Kugira ngo n'abo ku mpera y'isi ubashikirize agakiza. “

48 Abanyamahanga bavyumvise baranezerwa, bashimagiza ijambo ry'Imana; abari baragerewe ubugingo budashira bose barizera.

49 Ijambo ry'Umwami Yesu rikwira muri ico gihugu cose.

50 Ariko Abayuda bosha abagore b'icubahiro bubaha Imana, n'abakuru bo muri ico gisagara, bavyurira akadenderezo Pahulo na Barunaba, babirukana mu ntara yabo.

51 Na bo babakunkumurira umukungugu wo mu birenge vyabo, baja muri Ikoniyo.

52 Abigishwa buzuzwa umunezero na Mpwemu Yera.

© 2007 Bible Society of Burundi.

## Igitabo C' Ivyakozwe N'intumwa 14

1 Maze bari muri Ikoniyo bompi binjira mu rusengero rw'Abayuda, bavuga amajambo atuma Abayuda n'Abagiriki benshi cane bizera.

2 Ariko Abayuda banse kwumvira ivyo, bavyura urwanko mu mitima y'abanyamahanga ngo bagirire inabi abavukanyi.

3 Bamara imisi myinshi bavuga batabobotereza kubwo Umwami Yesu, ashingira intahe ijambo ry'ubuntu bwiwe, abaha gukora ibimenyetso n'ibitangaza n'amaboko yabo.

4 Ariko abantu bo muri ico gisagara birema ibice, bamwe baherera ku Bayuda, abandi ku ntumwa.

5 Kandi abanyamahanga, bo n'Abayuda n'abashingantahe babo baja kubatera ngo babagirire nabi babicishe amabuye;

6 barabimenya, bahungira i Lusitira n'i Derube, ibisagara vy'i Lukawoniya, no mu gihugu gihereranye na ho.

7 Bagumayo bavuga ubutumwa bwiza.

8 I Lusitira hari umugabo yari amugaye ibirenge uhereye aho yakaviriye mu nda ya nyina, nta ho yari yarigeze gutambuka.

9 Uwo yumva Pahulo avuga, na we amuhanze amaso abona ko afise ukwizera kwo gukizwa.

10 Avuga n'ijwi rirenga ati: "Haguruka uhagarare neza. " Arasimbasimba, aratambuka.

11 Maze ishengero ribonye ico Pahulo akoze, bavuga n'ijwi rirenga mu Kinyalukawoniya bati: "Imana zitumanukiyemwo zishushanije n'abantu. “

12 Barunaba bamwita Zeyu, Pahulo na we bamwita Herume, kuko ari we yari imvuzi.

13 Maze umuherezi wa Zeyu, ingoro y'umusezero wayo yari imbere y'igisagara, azana impfizi zisharijwe, agira acumite ikimazi, we n'ishengero.

14 Ariko intumwa, Barunaba na Pahulo, bavyumvise, bitaburirako impuzu zabo, bitera mu bantu, basemerera

15 bati: "Yemwe bagabo, ni iki gitumye mugira mutyo? Natwe turi abantu basanzwe, tumeze nkamwe, kandi tubabwira ubutumwa bwiza, ngo mureke ivyo bitagira ikimazi, muhindukirire Imana nzima, yaremye ijuru, isi, ikiyaga n'ibirimwo vyose,

16 ni yo yaretse amahanga yose mu bihe vyahise ngo bagendere mu nzira zabo.

17 Ariko ntiyabirekeye ngaho, itagira ico kuyishingira intahe, kuko yama ibagirira neza, ibaha imvura iva mw'ijuru, n'ibihe vy'umwimbu mwiza, ibahaza ivyo kurya, yuzuza imitima yanyu umunezero. “

© 2007 Bible Society of Burundi.

18 Aho bavuga ayo majambo, hari hasigaye gatoya ntibabe bakibuza ishengero kubacumitira ikimazi.

19 Maze haza Abayuda bavuye muri Antiyokiya no muri Ikoniyo; bamaze kwosha ishengero, batera Pahulo amabuye, bamukwegera inyuma y'igisagara, bagira ngo yapfuye.

20 Ariko abigishwa bahagaze bamukikije, aravyuka, aja mu gisagara; bukeye bw'aho avanayo na Barunaba, aja i Derube.

21 Bamaze kuvuga ubutumwa bwiza muri ico gisagara no guhindura benshi abigishwa, basubira i Lusitira, muri Ikoniyo no muri Antiyokiya,

22 baremesha imitima y'abigishwa, babahanura ngo bagume mu kwizera; kandi yuko dukwiye guca mu marushwa menshi mu kwinjira mu bwami bw'Imana.

23 Kandi bamaze kubatorera abakuru mu mashengero yose, no gusenga bisonzesha, babaragiza Umwami Yesu, uwo bizeye.

24 Baca i Pisidiya, bashika i Pamfiliya.

25 Bamaze kuvuga ijambo ry'Imana i Peruga baramanuka baja muri Ataliya;

26 bavayo bari mu bwato bafata muri Antiyokiya, aho bari barazigamishirijwe ubuntu bw'Imana ubwa mbere ku gikorwa baheraheje.

27 Bashitseyo bakoranya ishengero, babiganira ivyo Imana yakoranye na bo vyose, n'ingene yugururiye abanyamahanga umuryango rwo kwizera.

28 Bamarana n'abigishwa igihe kitari gito.

## Igitabo C' Ivyakozwe N'intumwa 15

1 Maze haza abantu bamwe bavuye i Yudaya bigisha abavukanyi bati: "Ni mutahimburwa igihimba c'ubugabo, nk'uko umugenzo wa Mose uri, ntimuzoruha mukizwa. “

2 Maze Pahulo na Barunaba bamaze kugira ibihari n'imburano itari mike n'abo bantu, abaho bahuza inama gutuma Pahulo na Barunaba n'abandi bamwe bo muri bo, ngo baje i Yerusalemu ku ntumwa n'abakuru ku bwo iyo miburano.

3 Nuko abo, ishengero rimaze kubaherekeza, baca i Foyinike bo n'i Samariya, babamenyesha ingene abanyamahanga bahindukiriye Imana, batera mu bavukanyi bose akanyamuneza kenshi.

4 Bashitse i Yerusalemu, ishengero n'intumwa n'abakuru barabakira, na bo babiganira ivyo Imana yakoranye na bo vyose.

5 Maze hava hasi bamwe bo mu muce w'Abafarisayo bizeye, baravuga bati: "Abanyamahanga birakwiye ko bahimbuwe igikoba c'ubugabo, no kubabwiriza kwitondera ivyagezwe vya Mose. “

© 2007 Bible Society of Burundi.

6Nuko intumwa n'abakuru bakoranira hamwe kuja inama y'iryo jambo.

7Habaye imburano myinshi, Petero ava hasi, arababwira ati: "Bagabo bavukanyi, murazi yuko kera Imana yantoranije muri mwebwe kugira ngo mu kanwa kanje habe ari ho abanyamahanga bumva ijambo ry'ubutumwa bwiza, bizere.

8Kandi Imana izi imitima, yarabashingiye intahe, hamwe yabaha Mpwemu Yera, nk'uko yamuduhaye natwe;

9ntiyashiraho itandukaniro hagati yacu na bo, yogesheje imitima yabo ukwizera.

10None rero ni iki gitumye mugerageza Imana, mwikoreza abigishwa imitwaro ba sogokuruza batashoboye kwikorera canke twebwe?

11Ariko twizeye yuko tuzokizwa n'ubuntu bw'Umwami Yesu nka bo. “

12Maze ishengero ryose riracereza, bumviriza Barunaba na Pahulo babiganira ibimenyetso n'ibitangaza vyose Imana yabahaye gukora mu banyamahanga.

13Barangije kuvuga, Yakobo aravuga ati: "Bagabo bavukanyi, ni munyumvirize.

14Simoni yabiganiye ingene Imana yatanguye kugendera abanyamahanga ngo ibarobanuremwo ubwoko bw'izina ryayo.

15Amajambo y'abavugishwa na yo ahuye n'ivyo, nk'uko handitswe,

16ngo Hanyuma y'ivyo nzogaruka, Nongere nubake urusago rwa Dawidi rwatemvye, Nongere nsanasane ahashize harwo, ndaruhagarike,

17Kugira ngo amasigarira y' abantu baronderane Uhoraho N'amahanga yose yitiririrwa izina ryanje,

18Ni ko Uhoraho avuze, akora ivyo vyose, yabimenye uhereye ku kuremwa kw'isi.

19Nuko rero inama yanje ni uko tureka kugora abo mu banyamahanga bahindukirira Imana,

20ariko tubandikire ngo bareke ibihumanya vy'ibigirwamana, no gusambana, no kurya ibinizwe, bo n'amaraso.

21Kuko uhereye kera hose Mose afise mu bisagara vyose abigisha ivyiwe, bisomwa mu nsengero z'Abayuda uko isabato ishitse. “

22Maze intumwa n'abakuru, bo n'ishengero ryose, bashima gutoranya abagabo muri bo, ni Yuda ari we Barusaba, na Sila, abantu bakuru mu bavukanyi, no kubatumana muri Antiyokiya na Pahulo na Barunaba.

23Bandika ikete, bararibarungikana, ryanditswe ritya, ngo intumwa n'abavukanyi bakuru turabatasha mwebwe bavukanyi bo mu banyamahanga bari muri Antiyokiya, i Siriya n'i Kilikiya.

24Kuko twumvise yuko bamwe bavuye muri twebwe bababahagarikishije imitima amajambo, bakayivyimvya, kandi tutababibageze;

© 2007 Bible Society of Burundi.

25duhuje inama, dushimye gutoranya abo bantu no kubatumana kuri mwebwe n'abo dukunda Barunaba na Pahulo,

26abantu bahevye amagara yabo kubwo izina ry' Umwami wacu Yesu Kristo.

27Nuko abo dutumye ni Yuda na Sila, na bo ubwabo bazobabarira mu rurimi bimwe n'ibi.

28Kuko Mpwemu Yera bimubereye vyiza, natwe ni uko, kutabikoreza uwundi mutwaro urenze ibi bikwiye;

29mureke kurya ivyashikaniwe ibigirwamana, amaraso, n'ibinizwe, mureke no gusambana; ivyo ni mwavyirinda, muzomera neza. Nuko muganuke.

30Nuko abo basezewe bamanuka muri Antiyokiya; bamaze gukoraniriza hamwe ishengero, babashikiriza kino cete.

31Bamaze kugisoma banezererwa iyo mpanuro.

32Na Yuda na Sila, kuko na bo bari abavugishwa n'Imana, bahanura abavukanyi mu majambo menshi, barabaremesha.

33Bahamaze imisi, abavukanyi babasezera amahoro, ngo basubire ku babatumye.

[ 34Mugabo Sila bimubera vyiza kugumayo. ]

35Kandi Pahulo na Barunaba baguma muri Antiyokiya bigisha abantu, bababwira ijambo ry' Umwami Yesu, bafatanije n'abandi benshi.

36Hashize imisi, Pahulo abwira Barunaba ati: "Ingo dusubire ha handi tugendere mu bavukanyi mu gisagara cose aho twamamaje ijambo ry'Umwami Yesu, tumenye uko bameze. “

37Barunaba agomba ko bajana na Yohana na we, ari we Mariko.

38Ariko Pahulo ntivyamubera vyiza kujana uwabataye i Pamfiliya, ntajane na bo muri ico gikorwa.

39Havyuka imitongano ibatera gutandukana, Barunaba ajana Mariko, avudukayo ari mu bwato, afata i Kupuro;

40Pahulo na we atoranya Sila, avayo, mu bavukanyi bamaze kumuragiza ubuntu bw'Umwami Yesu.

41Aca i Siriya n'i Kilikiya, aremesha amashengero.

## Igitabo C' Ivyakozwe N'intumwa 16

1Nuko ashika i Derube n'i Lusitira; hariyo umwigishwa yitwa Timoteyo, umwana w'umugore w'Umuyudakazi yizeye, ariko se yari Umugiriki;

2yashimwa n'abavukanyi b'i Lusitira no muri Ikoniyo.

© 2007 Bible Society of Burundi.

3Pahulo agomba ko bajana n'uwo aramwakira amuhimbura igikoba c'ubugabo, kubwo Abayuda bo muri izo ntara, kuko bose bari bazi yuko se yari Umugiriki.

4Bariko baraca mu bisagara, bagenda bababwira ivyo intumwa n'abakuru b'i Yerusalemu bashinze, ngo bavyitondere.

5Nuko amashengero akomerezwa mu kwizera, agenda yunguka ibitigiri imisi yose.

6Baca mu gihugu c'i Furugiya n'i Galatiya, babuzwa na Mpwemu Yera kuvuga ijambo ry'Imana muri Asiya.

7Bashitse ahabangikanye n'i Musiya, bagerageza kuja i Bituniya, Mpwemu wa Yesu ntiyabakundira;

8baca i Musiya baramanuka, bashika i Tirowa.

9Maze Pahulo arota inzozi mw'ijoro, abona umugabo w'i Makedoniya ahagaze amwinginga ati: "Jabuka uze i Makedoniya, udutabare. “

10Amaze kurota izo nzozi, duca turondera ingene tuja i Makedoniya, kuko tumenye yuko Imana iduhamagariye kubabwira ubutumwa bwiza. “

11Nuko tuvuduka i Tirowa mu bwato, turaramiriza tuja i Samotirake, bukeye bw'aho dushika i Neyapoli,

12tuvuyeyo dushika i Filipi igisagara gikuru co mu ntara y'i Makedoniya, cubatswe n'Abaroma. Tumara imisi muri ico gisagara.

13Ku musi w'isabato turenga irembo ry'igisagara, tuja ku ruzi, dukeka ko hobayo ahahora hasengerwa. Turicara, tuyaga n'abagore bahakoraniye.

14Umugore umwe yitwa Ludiya yubaha Imana, umudandaza w'impuzu zitukura z'igiciro kinini, wo mu gisagara citwa Tuwatira, aratwumviriza. Umwami Yesu amwugurura umutima, kugira ngo awushire ku vyo Pahulo yavuga.

15Amaze kubatizanywa n'abo mu nzu yiwe, aratwinginga ati: " "Asangwa mubonye ndi uwizeye Umwami Yesu, ni muze i wanje, musembereho. " " Aratugobera.

16Bukeye tugiye aho basengera, duhura n'umwigeme arimwo dayimoni aragura, yari atungishije ba shebuja cane kubwo iyo ndagu.

17Uwo aradukurikira twebwe na Pahulo, asemerera ati: " "Aba bantu ni abasavyi b'Imana Isumbavyose, kandi babababarira inzira y'agakiza. “

18Amara imisi myinshi agenza atyo. Ariko Pahulo adundumiwe, arahindukira, abarira dayimoni ati: "Ndakubariye mw'izina rya Yesu Kristo, muvemwo. " Amuvamwo muri ako kanya.

19Maze ba shebuja babonye yuko ico bazigako inyungu kivuyeho, bafata Pahulo na Sila, barabakwega babajana mu kaguriro imbere y'abashingantahe,

20babashira abacamanza bati: "Aba bantu bahagarika imitima y'abo mu gisagara cacu, kandi ari Abayuda;

© 2007 Bible Society of Burundi.

21batuzanira imigenzo tuzira kwemera canke gukora, twebwe turi Abaroma. “

22Ishengero ribahagurukira icarimwe, abacamanza babatabagurirako impuzu, bagera ko babakubita.

23Bamaze kubakubita inkoni nyinshi, babashira mw'ibohero, babarira umurinzi kubarinda cane.

24Na we abariwe atyo abashira mu nzu yo hagati, arobeza amaguru yabo mu mpatane z'ibiti.

25Maze nko mu gicugu Pahulo na Sila bariko barasenga baririmbira Imana, izindi mbohe zibumva,

26isi ica inyiganyiga cane giturumbuka, bituma amatanguriro y'inzu y'ibohero anyiganyiga, ako kanya imyango yose iruguruka, iminyororo ya bose iradohoka.

27Uwo murinzi yikanguye, abonye imyango y'ibohero yuguruye, asokora inkota agira yiyahure, kuko yagira ngo imbohe zatorotse.

28Ariko Pahulo asemerera n'ijwi rirenga ati: "Ntiwigirire nabi, twese turi hano. “

29Ahamagaza imuri, yitera mu nzu, ari mu gatengo k'ubwoba, yikubita imbere ya Pahulo na Sila,

30arabasohokana, arababaza ati: "Bagenzi, nkwiye gukora iki ngo nkire? “

31Baramwishura bati: "Izere Umwami Yesu, urakira, mwe n'abo mu nzu yawe. “

32Bamubarira ijambo ry'Umwami Yesu, n'abo mu nzu yiwe bose.

33Muri ico gihe nyene c'ijoro arabajana, abuhagira inguma z'inkoni, aca arabatizwa, bo n'abiwe bose.

34Arabadugana, abajana i we, arabagaburira, anezeranwa cane n'abo mu nzu yiwe bose, kuko yizeye Imana.

35Ijoro rikeye, abacamanza batuma abagendanyi bati: "Rekura abo bantu. “

36Umurinzi w'imbohe abarira Pahulo ayo majambo ati: "Abacamanza baratumye ngo murekurwe, nuko rero ni musohoke, mwigire amahoro. “

37Ariko Pahulo arabishura ati: "Ko badukubitiye imbere y'ishengero, ata kidutsinze, kandi turi Abaroma, bakadushira mw'ibohero; none bagomba kuduhinda mu mpisho? Ekaye, ni babe ari bo biyizira ubwabo badusohore. “

38Abo bagendanyi babarira abacamanza ayo majambo; na bo baratinya, bumvise ko ari Abaroma,

39baraza, babakomera ibobo, barabasohora, babinginga kuva muri ico gisagara.

40Bavuye mw'ibohero, baja kwa Ludiya, barinjira; bamaze kubona abavukanyi, barabahanura, bavayo.

© 2007 Bible Society of Burundi.

## Igitabo C' Ivyakozwe N'intumwa 17

1Bamaze guca muri Amfipoli no muri Apoloniya, bashika i Tesalonike, hariho isengero ry'Abayuda y'Abayuda.

2Nuko Pahulo, nk'uko yamenyereye, yinjira muri bo, amara amasabato atatu avugana na bo ivyo mu vyanditswe,

3abibasobanurira, amenyekanisha yuko Kristo yari uwo kubabazwa, no kuzuka mu bapfuye; kandi ati: "Yesu, uwo ndababwira, ni we Kristo. “

4Bamwe muri bo birabemeza, bifatanya na Pahulo na Sila, n'ishengero ryinshi ryo mu Bagiriki bubaha Imana n'uko, no mu bagore b'icubahiro batari bake.

5Ariko Abayuda bagize ishari, bajana abagabo b'imburakimazi bo mu bigaramangira, bakoranya abantu benshi, bavyura imigumuko mu gisagara, batera inzu ya Yasona, bashaka gukuramwo Pahulo na Sila, ngo babashikirize abantu.

6Bababuze, bakwegera Yasona n'abavukanyi biwe bamwe imbere y'abaganza igisagara, barasemerera bati: "Abateye isi yose umugumuko bashitse n'ino,

7kandi Yasona yabahaye indaro. Abo bose barenze ivyagezwe vya Kayisari, bavuga yuko hariho uwundi mwami, ngo ni Yesu. " “

8Ishengero rihakoraniye n'abaganza igisagara bahagarika imitima bumvise ivyo,

9nuko baka Yasona n'abandi ingwati, barabarekura.

10Nuko abavukanyi baca banyuruza Pahulo na Sila mw'ijoro baja i Beroya; maze bashitseyo binjira mu rusengero rw'Abayuda.

11Ariko abo bo bari imico myiza kuruta abo i Tesalonike, kuko bakiriye ijambo ry'Imana n'umutima ukunze, basesa mu vyanditswe uko bukeye, ngo bamenye yuko ivyo ari ivyo ukuri. “

12Nuko benshi muri bo barizera, n'abagore b'icubahiro b'Abagirikikazi n'abagabo batari bake.

13Ariko Abayuda b'i Tesalonike bamenye yuko ijambo ry'Imana rivugwa na Pahulo i Beroya kandi, bajayo na ho, bavyura imivurungano mu bantu, babahagarika imitima.

14Uwo mwanya abavukanyi biwe banyuruza Pahulo ngo ahave, aje ku kiyaga; ariko Sila na Timoteyo basigarayo.

15Kandi abaherekeje Pahulo bamugejeje muri Atenayi; maze babariwe kubwira Sila na Timoteyo ngo bamusangeyo ningoga, basubira inyuma.

16Ariko Pahulo akibarindiriye muri Atenayi, umutima wiwe utunturira muri we abonye ingene ico gisagara cuzuye ibigirwamana.

17Nuko aharirira n'Abayuda n'abubaha Imana mu rusengero rw'Abayuda imisi yose, no mu kaguriro yahaharirira n'abamusangaho.

© 2007 Bible Society of Burundi.

18Maze bamwe mu banyabwenge bitwa Abepikureyo, n'abandi bitwa Abasitoyiko
bahura na we. Bamwe muri bo barabazanya bati: "Mbega uwu adedemba agomba
kuvuga ibiki? " Abandi bati: "Umenga ni uwuzanye imana z'ivyaduka; kuko yavuga
ubutumwa bwiza bwa Yesu n'ubwo ukuzuka.

19Baramufata bamujana ahitwa Areyopago, baramubaza bati: "Mbega ubona
twoshobora kumenya ukwo kwigisha gusha uvuga uko ari kwo?

20Kuko utuzanye mu matwi ibintu vy'ivyaduka; none rero turagomba kumenya ivyo
ari vyo. “

21Kuko Abanyatenayi bose n'ab' akavantara bariho, batagira ikindi bakora, atari
ukwumva canke kudonda amakuru mashasha.

22Pahulo ahagarara hagati muri Areyopago, aravuga ati: "Bagabo bo muri Atenayi,
ndabonye muri vyose ko mukobeje kwubaha imana zanyu.

23Kuko aho nagendagenda nitegereza ivyo musenga, nasanze hari n'igicaniro
canditsweko, ngo ico IMANA ITAZWI. Nuko iyo musenga mutayizi, ni yo
ndababarira.

24Imana Rurema, yaremye isi n'ibirimwo vyose, iyo, kuko ari yo Mwami w'ijuru n'isi,
ntiba mu nsengero zubatswe n'amaboko,

25kandi ntikorerwa n'amaboko y'abantu, nk'uwuri n'ico akenye; kuko ari yo yahaye
bose ubugingo, no guhumeka, n'ibindi vyose.

26Kandi yaremye amahanga yose y' abantu, ibakuye mu muntu umwe, ngo bacumbike
mw'isi yose, yashinze ibihe vy'imyaka ko bikuranwa uko yageze, icira abantu imbibe
z'aho baba,

27kugira ngo barondere Imana, ngo namba kumbure bakabakavye boyibona, naho itari
kure y'umuntu n'umwe muri twebwe.

28Kuko muri yo ari ho tubeshejweho, tugenda, turi n'ubugingo; nk'uko na bamwe bo
mu bigeneye indirimbo banyu bavuze bati: 'Kuko natwe, turi uruvyaro rwayo.’

29Nuko rero, ko turi uruvyaro rw'Imana, ntidukwiye kwiyumvira yuko Imana isa
n'izahabu, canke ifeza, canke amabuye, ivyabajwe n'ubuhinga n'ubwenge bw'abantu.

30Nuko iyo misi y'ubutamenya, Imana yarayirengagije, ariko noneho, itegeka ko
abantu bose bari hose bihana,

31kuko yashinze umusi wo gucirako isi yose imanza z'ukuri, izozicisha umuntu
yatoranije, kandi yahaye bose ikimenyetso c'ivyo, mu kumuzura imukuye mu
bapfuye. “

32Maze bumvise ivyo ukuzuka mu bapfuye, bamwe barishinyira, abandi bati: "Tuzoba
turumva ukundi ivyo utubarira kuri ivyo. “

33Nuko Pahulo ava muri bo.

© 2007 Bible Society of Burundi.

34Ariko abagabo bamwe bifatanya na we barizera; muri bo umwe ni Diyonisiyo wo mu Bareyopago, kandi n'umugore yitwa Damari, hamwe n'abandi.

## Igitabo C' Ivyakozwe N'intumwa 18

1Hanyuma y'ivyo Pahulo ava muri Atenayi, aja i Korinto.

2Abonye Umuyuda yitwa Akwila, amamuko yiwe ni i Ponto, yari avuye muri Italiya muri iyo misi, bo n'umugore wiwe Purisikila, kuko Kilawudiyo yari yageze ko Abayuda bose bava i Roma; Pahulo aja aho bari.

3Kandi kuko bari bahuje ubuhinga, abana na bo, barunganiranira, kuko ubuhinga bwabo bwari ubwo kujisha amahema.

4Aharirira n'abaho mu rusengero rw'Abayuda amasabato yose, ngo yemeze Abayuda n'Abagiriki.

5Maze Sila na Timoteyo bamanutse, bavuye i Makedoniya, Pahulo agoberwa n'ijambo ry'Imana, ashingira intahe Abayuda yuko Yesu ari we Kristo.

6Na bo babiharirije batyoza, akunkumura impuzu ziwe, arababarira ati: "Amaraso yanyu araba ari mwebwe akora! Jeho ndacuna; guhera ubu ndaja ku banyamahanga. “

7Avaho, yinjira mu nzu y'umuntu yitwa Tito Yusito, yubaha Imana, inzu yiwe yari ihereranye n'urusengero rw'Abayuda.

8Ariko Krisipo, umukuru w'urusengero, yizerana Umwami Yesu n'abo mu nzu yiwe bose; n'Abakorinto benshi bumvise barizera, barabatizwa.

9Maze Umwami Yesu abarira Pahulo mw'ijoro nko mu nzozi ati: "Ntutinye, ariko uvuge, ntucereze,

10kuko ndi kumwe nawe, kandi nta muntu azogutera ngo akugirire nabi, kuko mfise abantu benshi muri iki gisagara. “

11Amarayo umwaka n'amezi atandatu, yigisha ijambo ry'Imana muri bo.

12Maze Galiyo abaye icegera ca Kayisari muri Akaya, Abayuda bahuza inama bakurira hasi Pahulo, bamujana imbere y'intebe y'imanza

13bati: "Uwu muntu yemeza abantu gusenga Imana uburyo bunyuranye n'ivyagezwe. “

14Pahulo ariko arahaga amatama, Galiyo abwira Abayuda ati: "Iyo haba hari habonetse ibirego vy'icaha, canke ikibi kigoye, yemwe Bayuda, hari kuboneka inyanduruko yuko ndabihanganira kubumva;

15ariko ko ari ibihari vy'amajambo n'ivyo amazina n'ivyo ivyagezwe vyanyu ubwanyu, ni mubimare ubwanyu. Jeho singomba guca urubanza rwa bene ivyo. " “

16Abirukana imbere y'intebe y'imanza.

© 2007 Bible Society of Burundi.

17Abagiriki bose basumira Sositene, umukuru w'isengero ry'Abayuda, bamukubitira imbere y'intebe y'imanza. Ariko Galiyo, ivyo vyose ntiyabibabara.

18Hanyuma y'ivyo Pahulo amarayo iyindi misi myinshi, maze asezera abavukanyi, avudukayo ari mu bwato ngo aje i Siriya, Purisikila na Akwila bajana na we, amaze kwimoshereza i Kenkireya; kuko yari mw'isezerano.

19Bashitse muri Efeso, abasiga ngaho; ariko we aragenda yinjira mu rusengero rw'Abayuda, aharira n'Abayuda.

20Bamwinginze ngo amareyo iyindi misi ntiyabakundira.

21Ariko asezerana na bo ati: " "Nzogaruka ikindi gihe, Imana ni yabigomba. " Avuduka muri Efeso ari mu bwato.

22Afashe i Kayisariya, araduga aja i Yerusalemu, aramutsa ishengero, aramanuka, aja muri Antiyokiya.

23Amazeyo imisi avayo, aca mu gihugu c'i Galatiya n'i Furugiya, aja mu bisagara uko bikurikirana, aremesha abigishwa bose.

24Maze Umuyuda yitwa Apolo, amamuko yiwe ni muri Alekisanderiya, yari umuntu w'ubwenge, ashika muri Efeso; yari Umunyabushobozi mu vyanditswe.

25Uwo yari yigishijwe inzira y'Umwami wacu, acanirwa mu mutima n'umwete, yavuga yigisha ivya Yesu avyitondeye, yari azi umubatizo wa Yohana gusa.

26Atangura kuvugira mu rusengero rw'Abayuda ashize amanga. Maze Purisikila na Akwila bamwumvise, bamujana i wabo, barushiriza kumutahuza inzira y'Imana.

27Agomvye kujabuka ngo aje muri Akaya, abavukanyi baramuremesha, bandikira abigishwa ngo bamwakire. Na we ashitseyo, ubuntu bw'Imana bumutera gufasha cane abizeye;

28kuko yatururuza Abayuda abatsindira imbere y'abantu, yerekana mu vyanditswe yuko Yesu ari we Kristo.

## Igitabo C' Ivyakozwe N'intumwa 19

1Maze Apolo akiri i Korinto, Pahulo aca mu bihugu vyo haruguru, ashika muri Efeso, asangayo abigishwa bamwe.

2Arababaza ati: "Mbega mwarahawe Mpwemu Yera igihe mwizera? " Baramwishura bati: "Ntitwaribwanavyumve yuko Mpwemu Yera yatanzwe. “

3Arababaza ati: "None mwabatijwe umubatizo ki? " Bati: "Umubatizo wa Yohana. “

4Pahulo ati: "Yohana yabatije umubatizo wo kwihana, abarira abantu ko bakwiye kwizera uwuzoza hanyuma yiwe, ni Yesu. “

5Bavyumvise babatizwa mw'izina ry'Umwami Yesu.

© 2007 Bible Society of Burundi.

6Pahulo amaze kubarambikako ibiganza, Mpwemu Yera abazako, bavuga izindi ndimi, bavugishwa n'Imana.

7Abo bose bari abagabo nk'icumi na babiri.

8Hanyuma Pahulo yinjira mu rusengero rw'Abayuda, amara amezi atatu avuga ashize amanga; akiranira ivyo ubwami bw'Imana abibemeza.

9Ariko bamwe bikomantaje imitima, b'intumva, batukira Inzira ya Yesu imbere y'abantu, ava muri bo, arobanura abigishwa, uko bukeye aharirira mu nzu yo kwigishirizamwo ya Turano.

10Bimara imyaka ibiri bimeze bityo. Nuko ababa muri Asiya bose Abayuda n'Abagiriki bumva ijambo ry' Umwami wacu.

11Kandi Imana ikoresha amaboko ya Pahulo ibitangaza vy' agaheta.

12Vyatuma bashira abarwaye ibitambara n'ivyambazo bivuye ku mubiri wiwe, bagakira indwara zabo, ibisigo bikabavamwo.

13Ariko inyererezi zimwe zo mu Bayuda zirukana ibisigo zigerera kuvugira izina ry'Umwami Yesu hejuru y'abafashwe n'ibisigo ziti: "Tubarahiye Yesu, uwo Pahulo avuga. “

14Kandi hariho abahungu indwi b' Umuyuda yitwa Sikewa, umwe mu baherezi bakuru, bagenza batyo.

15Igisigo kirabishura kiti: "Yesu ndamuzi, na Pahulo ndamuzi, ariko mweho muri ba nde? “

16Umuntu arimwo igisigo abagurukirako bompi, arabanesha, arabirukana, bahunga muri iyo nzu bambaye ubusa bakomeretse.

17Ivyo bimenyekana mu Bayuda no mu Bagiriki bose baba muri Efeso, bose baterwa n'ubwoba, izina ry'Umwami Yesu rishirwa hejuru.

18Kandi benshi mu bari barizeye baraza, batura ivyo bakoze, barabiserura.

19Benshi no mu bakora ivyo ubupfumu bakoranya ibitabo vyabo vy'ubupfumu, babituririra mu maso ya bose. Baharura igiciro cavyo, basanga gishitse ku ntete z'ifeza ibihumbi mirongo itanu.

20Uko ni ko ijambo ry'Umwami Yesu ryagwiriye cane, rigira ububasha.

21Ivyo bishize Pahulo yiyumvira mu mutima wiwe guca i Makedoniya no muri Akaya aja i Yerusalemu ati: "Ni namara gushikayo, nkwiye kuja kuraba n'i Roma na ho. “

22Atuma abagenda bamukorera babiri, Timoteyo na Erasito, ngo baje i Makedoniya; ariko we, atebera muri Asiya imisi.

23Nko muri ico gihe havyuka imivurungano itari mike ku bwo Inzira ya Yesu.

© 2007 Bible Society of Burundi.

24Hari umuntu yitwa Demetiriyo, umucuzi w'ifeza, yacura utuzu tw'ibigirwamana twa Arutemi mw'ifeza, akaronkesha abacuzi biwe inyungu nyinshi.

25Nuko abakoraniriza hamwe n'abandi bakora ibikorwa bene ivyo, arababwira ati: "Yemwe bagabo, murazi yuko ubutunzi bwacu buva muri iki gikorwa.

26Murabona kandi murumva yuko atari muri Efeso honyene, ariko nko muri Asiya hose, umwe Pahulo yoheje abantu benshi akabahindura ati: 'Imana zakozwe n'intoke si zo mana.'

27Si uko igikorwa cacu kiri mw'irinde kigiye gukengerwa gusa, ariko kandi n'ingoro y'umusezero w'imanakazi ihambaye Arutemi yotiturwa, mbere yonakurwako icubahiro cayo gikomeye, ari yo abo muri Asiya bose n'isi yose basenga. “

28Bavyumvise karaziriringa, barasemerera bati: "Arutemi y'Abanyefeso irahambaye. “

29Maze igisagara cose kiravurungana, bashwabadukira icarimwe baja ku kibuga c'ibirori, batwara Abanyamakedoniya, Gayo na Arisitariko bagendana na Pahulo amaguru adakora hasi.

30Maze Pahulo agomvye kuja muri iryo koraniro ry'abantu, abigishwa baramutesha.

31Kandi bamwe mu bakuru bo muri Asiya, kuko bari abagenzi, bamutumako bamwinginga ngo ntiyirohe mu kibuga c'ibirori.

32Nuko barayogora, bamwe ukwabo abandi ukwabo, kuko iryo shengero ryavurunganye, abenshi batari bazi icatumye bakorana.

33Maze basokorora Alekisandero mu bantu, Abayuda bamwigiza imbere. Maze Alekisandero arabamama, agira yiregure ku bantu.

34Ariko bamumenye ko ari Umuyuda, bose basemererera icarimwe, bamara nk'amasaha abiri bati: "Arutemi y'Abanyefeso irahambaye. “

35Umwanditsi (ari we mukuru w'igisagara) amaze guhoza ishengero, arababarira ati: "Bagabo b'Abanyefeso, mbega hariho umuntu atazi yuko igisagara c'Abanyefeso ari co kizigama ingoro y'imisezero y'imanakazi ihambaye Arutemi, ari co gishushanyo cakorotse kiva mw'ijuru? “

36None ko ata woshobora guhakana ivyo, mukwiye guhora, no kutagira ico mukora mutitonze.

37Kuko muzanye aba bagabo, bativye ivyo mu ngoro z'imana kandi batatyoje ku manakazi yacu.

38Nuko Demetiriyo n'abacuzi bari kumwe na we, namba bafise uwo barega, imisi y'imanza iriho, kandi hariho n'ivyegera vya Kayisari, ni baregane.

39Ariko ni mwaba mufise ibindi murondera, bizomarirwa mw'ikoraniro risanzwe.

© 2007 Bible Society of Burundi.

40Mbere turi mw'irinde, kumbure ibibaye uwu musi vyotuma turegwa ubugarariji, kuko ata nyanduruko; kandi ntituzoshobora gusobanura icakoranije iri shengero rivurunganye.

41Avuze ivyo, acura ikoraniro.

## Igitabo C' Ivyakozwe N'intumwa 20

1Umugumuko umaze gushira, Pahulo atumako abigishwa, arabahanura, arabasezera, avayo ngo aje i Makedoniya.

2Amaze guca muri ivyo bihugu, abahanura mu majambo menshi, aja i Bugiriki.

3Amarayo amezi atatu; maze Abayuda bamugiriye inama yo kumutega agira atambukire mu bwato aja i Siriya, yiyumvira gusubira inyuma aciye i Makedoniya.

4Abajana na we bagashikana no muri Asiya ni: Sopatero umwana wa Puro w'i Beroya, abo i Tesalonike ni: Arisitariko, Sekondo, Gayo w'i Derube na Timoteyo, abo muri Asiya ni: Tukiko na Tirofimo.

5Abo bari babaye baragenda imbere, baturorerera i Tirowa.

6Natwe tuvuduka i Filipi turi mu bwato hanyuma y'imisi y'imitsima itambiwe, tubasanga i Tirowa ku musi ugira gatanu, tumarayo imisi indwi.

7Ku wa mbere w'imisi indwi, dukoranira kumanyagura imitsima, Pahulo ayaga na bo, agira ngo buce agenda, atevya mu majambo ashitsa mu gicugu.

8Maze hari amatara menshi mu cumba co mu nzu yo hejuru aho twari dukoraniye.

9Kandi mw'idirisha hari hicaye umusore yitwa Eyutuko, aremerwa n'itiro ryinshi; maze Pahulo arushirije gutevya mu majambo, itiro riramuremera, arakoroka avuye mw'igorofa ya gatatu, bamuyora ahwereye.

10Pahulo arururuka, amwubama hejuru, aramugumbira ati: "Mureke gukoma induru, kuko ubugingo bwiwe bukiri muri we. " “

11Asubira kwurira, amanyagura umutsima, ararya, ayaga na bo igihe kirekire, ashitsa no mu bucagucagu, maze aragenda.

12Bazana uwo muhungu ari muzima, imitima yabo iraruhuka.

13Ariko tweho twabaye turagenda imbere dutambukira mu bwato, turajabuka dufata muri Aso, aho twari dutumbereye guhitana Pahulo; kuko yari yabishinze atyo, kugira ngo we ace i musozi.

14Adusanze muri Aso turamujana, turajabuka dufata i Mitulene.

15Tuvuyeyo, bukeye bw'aho dushika imbere y'i Kiyo, ku musi ugira gatatu dufata i Samo, bukeye dufata i Mileto.

© 2007 Bible Society of Burundi.

16Kuko Pahulo yari yiyumviriye guca i ruhande ya Efeso, kugira ngo ntatebe muri
Asiya; kuko yihuta, ngo ni vyashoboka umusi wa Pentekote uzoshike ari i
Yerusalemu.

17Ari i Mileto atuma muri Efeso, atumako abakuru b'ishengero.

18Na bo bashitse aho ari, arababwira ati: " "Ubwanyu murazi ingene nabana namwe
na ntaryo, uhereye umusi natanguriye gushika muri Asiya,

19nkorera Umwami wacu n'umutima wicishije bugufi, kandi ndira, nterwa
n'ibingerageza ku bwo inama z'Abayuda.

20Kandi murazi yuko ata jambo ribereye nacishije i ruhande kubabwira canke
kubigishiriza imbere y'abantu mu nzu no mu yindi.

21Nashinze intahe mu Bayuda no mu Bagiriki y'ukwihana mu maso y'Imana,
n'ukwizera Umwami wacu Yesu Kristo.

22None raba, ngiye i Yerusalemu mboshwe mu mutima, ntazi ibizombako nshitseyo;

23atari uko Mpwemu Yera anshingira intahe mu gisagara cose yuko iminyororo
n'ivyago bintegeyeyo.

24Ariko simbababaye ubugingo bwanje nk'aho ari ubwo igiciro, kugira ngo ndangize
urugendo rwanje, n'igikorwa nahawe n'Umwami Yesu, co gushingira intahe
ubutumwa bwiza bw'ubuntu bw'Imana.

25Kandi none raba, ndazi yuko mutazosubira kubona mu maso hanje, abo naciyemwo
mwese ndababwira ivyo ubwami bw'Imana.

26Ni co gituma ndabashingira intahe uwu musi ncuna, yuko amaraso ya bose
atazonkora,

27kuko ntacishije i ruhande ndababwira ivyo Imana yashatse vyose.

28Mwirinde ubwanyu, muzigame n'ubusho bwose Mpwemu Yera yabashizemwo, ngo
mube abo kubuzezwa, kugira ngo muragire ishengero ry'Imana, iryo yaguze amaraso
yayo.

29Ndazi yuko ni namara kuhava, amabingira y'inkazi azobinjiramwo atababaye
umukuku.

30Kandi no muri mwebwe ubwanyu hazokwadukamwo abantu bavuga ibigoramye
kugira ngo bakwegere abigishwa inyuma yabo.

31Nuko mwame mugavye, mwibuke yuko namaze imyaka itatu ntasiba guhanura
umuntu wese ndira, ku murango no mw'ijoro.

32Kandi ubu ndabaragije Imana n'ijambo ry'ubuntu bwayo, rishobora kububaka no
kubahera ibiragwa hamwe n'abejejwe bose.

33Nta co nifuje, ari ifeza ari izahabu ari imyambaro y'umuntu n'umwe.

© 2007 Bible Society of Burundi.

34Ubwanyu murazi ko aya maboko yanje yankenurana ivyo nkenye n'abo turi kumwe.

35Nabahaye akarorero muri vyose, yuko mu butame nk'ubwo, ari ko mukwiye gufasha abadakomeye, no kwibuka amajambo y'Umwami Yesu, ingene ubwiwe yavuze ati: 'Gutanga kuzana umugisha, kuruta guhabwa.'

36Amaze kuvuga atyo, arapfukama, asengera hamwe na bo bose.

37Bose bararira cane, bagwa Pahulo mu nda, baramugumbira;

38canecane bababajwe n'ijambo yababwiye ngo ntibazosubira kumubona mu maso. Maze baramuherekeza, bamugeza ku bwato.

## Igitabo C' Ivyakozwe N'intumwa 21

1Tumaze gutandukana na bo, no gutambukira mu bwato, turaramiriza tuja i Kosi; bukeye bw'aho dufata i Rodo, tuvayo dufata i Patara.

2Dusanze ubwato bugira bujabuke buja i Foyinike, tubutambukiramwo turagenda.

3Tubonye i Kupuro tuhasiga mu bubamfu, tuja i Siriya, dufata muri Tiro; kuko ari ho bari bategerezwa gukurira ibintu mu bwato.

4Tuhasanze abigishwa, dusibirayo imisi indwi; na bo bavugishijwe na Mpwemu babarira Pahulo ngo ntaje i Yerusalemu.

5Turangije iyo misi, tuvayo turagenda, bose baduherekezanya n'abagore n'abana, baturenza igisagara, dupfukama ku musenyi, turasenga.

6Tumaze gusezerana dutambukira mu bwato, na bo basubira i wabo.

7Natwe turangije urugendo rwo kuva muri Tiro, dufata i Putolemayi, turamutsa abavukanyi, tumarana na bo umusi umwe.

8Bukeye bw'aho tuvayo, dushika i Kayisariya, twinjira mu nzu ya Filipo umuvuzi w'ubutumwa bwiza, n'umwe muri ba bandi indwi, twaka indaro i we.

9Uwo yarafise abakobwa bane b'inkumi, bavugishwa n'Imana.

10Tugitevyeyo imisi myinshi, haza uwuvugishwa n'Imana yitwa Agabo, yari amanutse avuye i Yudaya.

11Aza aho turi, yakira umukaba wa Pahulo, awibohesha amaguru n'amaboko, aravuga ati: "Uku ni ko Mpwemu Yera agize, nyene uwu mukaba, uku ni ko Abayuda bazomubohera i Yerusalemu, bazomushira mu maboko y'abanyamahanga. "

12Maze twumvise ivyo, twebwe n'abantu baho turamwinginga ngo ntaduge i Yerusalemu.

13Maze Pahulo aratubaza ati: "Mukora ibiki, kurira mundandura umutima? Siniteguye kuboherwa gusa i Yerusalemu, ariko no gupfirayo, kubwo izina ry'Umwami Yesu. "

14Yanse guharurwa, turihorera tuti: "Ivyo Umwami agomba ni bibeho! " "

© 2007 Bible Society of Burundi.

15Hanyuma y'iyo misi dutekera ibintu vyacu, turaduga tuja i Yerusalemu.

16Bamwe mu bigishwa bavuye i Kayisariya turajana, bazana Umunyakupuro yitwa Munasona, yari umwigishwa wa kera, tuba ari we dusemberako.

17Dushitse i Yerusalemu abavukanyi batwakirana umunezero. “

18Bukeye bw'aho Pahulo yinjirana natwe kwa Yakobo, abakuru bose ni ho bari bari.

19Amaze kubaramutsa, ababarira ivyo Imana yakoze mu banyamahanga imukoresheje, abidonze kimwekimwe.

20Na bo bavyumvise bahimbaza Imana; maze baramubwira bati: "Urabona, muvukanyi, ingene Abayuda bizeye ari ibihumbi vyinshi; kandi bose bagira ishaka ry'ivyagezwe.

21Kandi babariwe ivyawe, yuko wigisha Abayuda bose bari mu banyamahanga guheba ivya Mose, ukavuga ngo ntibakwiye guhimbura igikoba c'ubugabo bana babo canke kugendera mu migenzo yacu.

22None icobimara ni igiki? " Ntibazobura kwumva ko waje.

23Nuko genza utya, uko tukubwira. Dufise abagabo bane bari n'ico basezeranye.

24Ubajane, wihumanurane na bo, ubaterere, ngo babone kwimosha. Maze bose bazomenya yuko ivyo baguteranije kuri bo ata kuri kurimwo, kandi ko nawe ubwawe ugenda witonze, witondera n'ivyagezwe.

25Yamara ivyo abizeye bo mu banyamahanga, twanditse dushinze ko birinda kurya ivyashikaniwe ibigirwamana, bo n'amaraso, bo n'ibinizwe, birinde no gusambana. “

26Nuko Pahulo ajana abo bagabo, bukeye bw'aho yihumanurana na bo, yinjirana na bo mu rusengero, avuga igihe imisi yo guhumanurwa izoshirira, agenza atyo gushitsa aho ikimazi c'umuntu wese muri bo catangiwe.

27Nuko iyo misi indwi igira ishire, Abayuda bavuye muri Asiya bamubonye mu rusengero, bavurunga ishengero ryose, bamushorerako amaboko,

28baratabaza bati: "Bagabo b'Abisirayeli, mudutabare! " Nguwu wa muntu yigisha hose abantu bose, akengereza ubu bwoko n'ivyagezwe n'aha hantu. Ikigeretseko yazanye n'Abagiriki mu rusengero, yahumanije aha hantu hera.

29Kuko bari babonye Tirofimo w'Umunyefeso ari kumwe na we mu gisagara, bagira ngo Pahulo yamujanye mu rusengero.

30Igisagara cose kiravurungana, abantu barashwabaduka, basumira Pahulo, baramukwega bamukura mu rusengero; ako kanya bugara imyango.

31Bakirondera ingene bamwica, inkuru ishika ku mukuru w'intwazangabo z'abasoda yuko abo muri Yerusalemu bose bavurunganye.

32Aca ajana abasoda n'intwazangabo zabo, abamanukira yiruka. Na bo babonye uwo mukuru w'abagabisha n'abasoda, basigaho gukubita Pahulo.

© 2007 Bible Society of Burundi.

33Maze uwo mukuru w'intwazangabo arabashikira, aramufata, avuga ko bamufatisha iminyororo ibiri, abaza uwo ari we, n'ico akoze ico ari co.

34Abo mw'ishengero barayogora, bamwe ukwabo abandi ukwabo; abujijwe n'ukuyogora kumenya ukuri, avuga ko bamujana mu gisagara gikikijwe n'uruhome rw'amabuye.

35Ashitse ku ngazi y'amabuye abasoda baramuterura kubwo ubukari bw' abantu,

36kuko ishengero ry abantu ryabaja inyuma, basemerera bati: "Kuraho uwo. “

37Bagira bamushikane mu gisagara gikikijwe n'uruhome rw'amabuye, Pahulo abaza uwo mukuru w'abagabisha ati: "Wonkundira ijambo nkubarira? " Na we aramubaza ati: "Urazi Ikigiriki? “

38Si wewe wa Munyegiputa yateye umugararizo mu gihe gishize, akajana mu bugaragwa abantu b'abicanyi ibihumbi bine?

39Pahulo aramwishura ati: "Ndi Umuyuda, umuntu w'i Taruso, igisagara c'i Kilikiya kitayoberanye, none ndakwinginze unkundire ico mbarira abantu. “

40Amukundiye, Pahulo ahagarara ku ngazi y'amabuye, amama abantu; hamaze kuba agacerere rwose, ababarira mu Giheburayo,

## Igitabo C’ Ivyakozwe N’intumwa 22

1Ati: "Yemwe bagabo bavukanyi kandi ba data, ni mwumvirize ivyo nireguza muri mwebwe. “

2Bumvise ababariye mu Giheburayo, barushiriza gucereza. Aravuga

3ati: "Ndi Umuyuda, navukiye i Taruso h'i Kilikiya, ariko nakuriye muri iki gisagara, nigishirizwa imbere y'ibirenge vya Gamaliyeli nk'uko uruhande rugoye rw'ivyagezwe vya ba sogokuruza ruri, ngira ishaka ry'Imana, nk'uko namwe mwese murifise uwu musi. “

4Kandi nahama abakurikira Inzira ya Yesu gushitsa bapfuye, nkababoha abagabo n'abagore nkabashira mu mabohero.

5Kandi n'umuherezi mukuru na we aranshingira intahe y'ivyo, bo n'abacamanza bose. Ni bo bampaye amakete yandikiwe abavukanyi bacu b'i Damasiko, ikinjanyeyo ari ukuzana i Yerusalemu abaho na bo bari mu ngoyi, ngo bishure.

6Nuko nkigenda, nshitse hafi y'i Damasiko, hari nko mu mashoka, umuco uhambaye uza giturumbuka uvuye mw'ijuru, unkayanganira irya n'ino.

7Nikubita hasi numva ijwi rimbaza riti: "Sawuli, Sawuli, umpigira iki? “

8Nanje ndabaza nti: "Uri nde ga Mwami? "Aranyishura ati: "Ndi Yesu Umunyanazareti, uwo uriko urahiga. “

© 2007 Bible Society of Burundi.

9Kandi n'abo twari kumwe umuco barawubonye, ariko ntibumva ijwi ry'uwo tuvugana.

10Ndamubaza nti: "Ngire nte ga Mwami? " Umwami aranyishura ati: "Va hasi, ushike i Damasiko, ni ho uzobaririrwa ivyashinzwe ko uzokora. “

11Maze ubwiza bw'uwo muco bumpumishije, abo twari kumwe bamfata ukuboko, nshika i Damasiko.

12Umugabo yitwa Ananiya, yubaha Imana mu kwumvira ivyagezwe, yashimwa n'Abayuda bose babayo,

13aza aho ndi, ampagarara hejuru, arambarira ati: "Sawuli, muvukanyi, humuka. " Ako kanya ndahumuka, ndamuraba.

14Aravuga ati: "Imana ya ba sogokuruza yagutoranirije kumenya ivyo igomba, no kubona wa Mugororotsi, no kwumva ijwi riva mu kanwa kiwe,

15kuko uzomubera icabona ku bantu bose ku vyo wabonye kandi wumvise.

16None ikigutevya ni iki? Va hasi, ubatizwe, wiyuhagire ivyaha vyawe, wambaze izina ryiwe. “

17Maze ngarutse i Yerusalemu, nariko ndasenga mu rusengero, mera nk'uwurota,

18ndamubona ambwira ati: "Tebuka, uve i Yerusalemu vuba, kuko batazokwemera ivyo unshingira intahe. “

19Nanje nti: "Mwami, na bo ubwabo barazi yuko nashira abakwizeye mw'ibohero, nkabatonagurira mu nsengero zose z'Abayuda.

20Kandi hamwe amaraso y'uwagushingira intahe Stefano yava, nanje ni ho nari mpagaze, ndabishimye, nsanze impuzu z'abamwica. “

21Aranyishura ati: "Genda, kuko nzogutuma kure ku banyamahanga. “

22Baramwumviriza gushitsa kuri iryo jambo; maze basemerera n'ijwi rirenga bati: "Kura uwumeze atyo mw'isi, na kare ntiyari abereye kubaho. “

23Bakiyogora, bata impuzu zabo, basurira umukungugu mu kirere,

24umukuru w'intwazangabo z'abasoda avuga ko bamwinjiza mu gisagara gikikijwe n'uruhome rw'amabuye, ababarira kumukubitisha ibimoko, kugira ngo amenye icatumye bamuvugiriza urwamo batyo.

25Bamaze kumubohesha imigozi, Pahulo abaza intwazangabo z'abasoda ijana ahagaze aho ati: "Mbega biremerwa ko mukubita umuntu w' Umuroma, kandi ata rubanza rwamutsinze? “

26Iyo ntwazangabo ivyumvise, ija ku mukuru w'abasoda, irabimumenyesha iti: "Ugira ukore iki? Erega wa muntu ni Umuroma. “

© 2007 Bible Society of Burundi.

27Uwo mukuru w'intwazangabo araza, aramubaza ati: "Mbarira, mbega uri Umuroma? " Na we ati: "Ego me. “

28Uwo mukuru aramubarira ati: "Jewe naguze ubwo buroma amahera menshi. " Pahulo ati: "Ariko jeho nabuvukiyemwo. " “

29Nuko abari bagiye kumucaca baca baramureka; umukuru w'abagabisha na we aratinya, amenye ko ari Umuroma, kandi yamuboshe.

30Ariko bukeye bw'aho, agomvye kumenya neza ico Abayuda bamurega ico ari co, aramubohora, agera ko abaherezi bakuru bakorana n'abacamanza bose, amanukana Pahulo amuhagarika imbere yabo."

## Igitabo C' Ivyakozwe N'intumwa 23

1Pahulo ahanga amaso abacamanza, arababwira ati: "Bagabo bavukanyi, namanye umutima utarimwo ijwi rinyagiriza ikibi na kimwe imbere y'Imana gushitsa kuri uwo musi. “

2Ananiya umuherezi mukuru abarira abamuhagaze i ruhande kumukubita ku munwa.

3Maze Pahulo aramubwira ati: "Imana izogukubita, wa rusika rukuyengejeko ingwa, mbega wewe ko wicaritswe no kuncira urubanza nk'uko ivyagezwe biri, ugatako ukavuga ko bankubita ukanyuranya n'ivyagezwe? “

4Abari bahagazeho bati: "Mbega uratuka umuherezi mukuru w'Imana? “

5Pahulo ati: "Sinari ndamuzi, bavukanyi, ko ari umuherezi mukuru; kuko handitswe ngo Ntukavuge nabi umukuru wo mu bwoko bwanyu. “

6Maze Pahulo amenye yuko umuce umwe ari uwo Abasadukayo, uwundi ari uwo Abafarisayo, ashira ijwi hejuru mu bashingantahe ati: "Bagabo bavukanyi, ndi Umufarisayo, ndi umwana w'Abafarisayo; ivyo ivyizigiro vy'ibizoba n'ukuzuka kw'abapfuye ni vyo bimpagaritse muri izi manza. “

7Avuze atyo, havyuka ibihari mu Bafarisayo n'Abasadukayo, abanyarubanza birema ibice.

8Kuko Abasadukayo bahakana yuko ata kuzuka kuriho, canke umumarayika n'impwemu; ariko Abafarisayo bavyemera vyose.

9Habaho urwamo rwinshi; bamwe mu bahinga b'ivyanditswe bo mu muce w'Abafarisayo bava hasi baraharira bati: "Nta kibi twabonye kuri uwo muntu. Kumbure impwemu canke umumarayika yoba yavuganye na we. “

10Habaho ibihari vyinshi, umukuru w'intwazangabo z'abasoda atinye ko bogabangana Pahulo, abarira ingabo ngo zimanuke zimubashikure, zimujane mu gisagara gikikijwe n'uruhome rw'amabuye.

11Ijoro ry'uwo musi, Umwami Yesu amuhagarara hejuru ati: "Humura; nk'uko wanshingiye intahe i Yerusalemu, ni ko ukwiye kuzonshingira intahe i Roma. “

© 2007 Bible Society of Burundi.

[12]Iryo joro rikeye, Abayuda barakorana, barahira bisiba yuko batazorya ntibanywe batarica Pahulo.

[13]Abahize batyo barenga mirongo ine.

[14]Baja ku baherezi bakuru n'abakuru bati: "Twarahiye twisivye bikomeye yuko ata co tuzotamira tutarica Pahulo. "

[15]Nuko rero mwebwe n'abashingantahe, ni mubwire umukuru w'intwazangabo z'abasoda amubamanukanire, nk'abarondera kurushiriza gutahura ivyiwe neza. Natwe, atarabashikira, twiteguye kumwica. "

[16]Umwishwa wa Pahulo yumva uwo mutego, araza ashika mu gisagara gikikijwe n'uruhome rw'amabuye, abibarira Pahulo.

[17]Pahulo ahamagara umwe mu ntwazangabo z'abasoda ijana ati: "Jana uwu muhungu ku mukuru w'intwazangabo z'abasoda; afise ijambo amubarira. "

[18]Na we aramujana amushira uwo mukuru w'abagabisha ati: "Ya mbohe Pahulo yampamagaye aranyinginga, ngo nkuzanire uwu muhungu, afise ico akubarira. "

[19]Uwo mukuru amufata ukuboko, aramukebukanya aramubaza biherereye ati: "Ico ufise kumbarira ni igiki? "

[20]Aramwishura ati: "Abayuda bahuje inama yo kukwinginga ngo ejo uzomanukane Pahulo mw'ikoraniro ry'abashingantahe, nk'uwugomba kubaza ivyiwe ngo urushirize kubimenya neza. "

[21]None rero ntuje kubumvira, kuko abantu babo barenga mirongo ine bamuryamiye, barahiye bisivye ko batazorya ntibanywe bataramwica; kandi none bariteguye, barorereye ico uribubemerere.

[22]Uwo mukuru arungika uwo muhungu, amaze kumwihanikiriza ati: "Ntugire umuntu ubarira yuko umenyesheje ivyo. "

[23]Ahamagara babiri bo mu ntwazangabo z'abasoda ijana, arababarira ati: "Ni mwitegure abasoda amajana abiri bo kuja i Kayisariya, n'abagendera ku mafarasi mirongo irindwi, n'abo amacumu amajana abiri, bahenge mw'ijoro isaha zitatu bagende. "

[24]Kandi bazane n'amafarasi kugira ngo bayashireko Pahulo, bamushikane kwa Feliki icegera ca Kayisari akiri muzima.

[25]Yandika ikete nka bene iri

[26]ati: "Jewe Kilawudiyo Lusiya ndakuganutsa wewe Feliki umwubahwa, icegera ca Kayisari.

[27]None uwo mugabo Abayuda bari bamaze kumuta mu maboko bagira bamwice, nanje menye ko ari Umuroma nzanana n'ingabo ndamubakiza.

© 2007 Bible Society of Burundi.

28Kandi nshatse kumenya ico bamurega, ndamumanukana mw'ikoraniro ry'abashingantahe ryabo.

29Mbona yuko bamurega amajambo y'ivyagezwe vyabo, ariko ko ata co yarezwe gikwiye kumwicisha canke kumubohesha.

30Maze mbariwe yuko bahigiye uwo mugabo, nca ndamukurungikira, mbarira abarezi ko bamuregera imbere yawe. Ndakwikebanuye. “

31Nuko abasoda bakira Pahulo uko babariwe, bahenga mw'ijoro bamujana muri Antipatiri.

32Bumaze guca basigayo abagendera ku mafarasi, ngo abe ari bo bajana na we, na bo basubira iyo bavuye ku gisagara gikikijwe n'uruhome rw'amabuye.

33Abo bashitse i Kayisariya bashira icegera ca Kayisari ca cete, bamushikiriza na Pahulo.

34Amaze kugisoma abaza intara y'i wabo iyo ari yo; amenye ko ari uwo i Kilikiya,

35aravuga ati: "Nzokwumva ivyawe abarezi bawe ni bamara kuza. " Agera ko bamurindira mu gisagara ca Herode gikikijwe n'uruhome rw'amabuye.

## Igitabo C’ Ivyakozwe N’intumwa 24

1Imisi itanu ishize, umuherezi mukuru Ananiya amanukana n'abakuru bamwe n'uwo kubavuganira yitwa Teritulo, barega Pahulo ku cegera ca Kayisari.

2Amaze guhamagazwa, Teritulo atangura kumurega ati: "Ni ku bwawe igituma tugazagaza mu mahoro menshi, n'ibindi vyaroranirijwe ubu bwoko kubwo imigabo yawe;

3nuko turavyemera uburyo bwose ahantu hose, Feliki umwubahwa, tugukengurukiye cane. “

4Reka simpave ndakurambira, ndakwinginze zirikana tuvuge amajambo make, kubwo ubugwaneza bwawe.

5Twabonye uwu muntu ari ikiza, atera umugararizo Abayuda bose bari mu bihugu vyose; ni we mukuru w'igice c'Abanazareti.

6Kandi yagejeje no guhumanya urusengero, turamufata, [twari tugomvye kumucira urubanza nk'uko ivyagezwe vyacu bivuga.

7Ariko umukuru w'intwazangabo z'abasoda Lusiya araza, amudushikura mu maboko,

8abarira abarezi biwe kuza imbere yawe. ] Nawe ni wamwibariza ubwawe urashobora kumenya ivyo tumureze vyose. “

9Abayuda na bo bafatanya na we muri ico kirego, bavuga ko ivyo ari ko biri.

© 2007 Bible Society of Burundi.

10Icegera ca Kayisari kimaze kumukebura ngo avuge, Pahulo aramwishura ati: "Ndazi ko umaze imyaka myinshi uri umucamanza w'ubu bwoko, ni co gitumye niregura ivyanje ndemye;

11kuko ushobora kumenya yuko imisi itararenga icumi n'ibiri, uhereye aho nadugiye i Yerusalemu gusengerayo.

12Kandi ntibasanze mparira n'umuntu n'umwe, canke nkoraniriza abantu kubakikiza, naho hoba mu rusengero canke mu nsengero z'Abayuda canke mu gisagara.

13Kandi ku vyo bandeze ubu, ntibashobora kuronka ikinyagiriza imbere yawe.

14Ariko iki ni co nkwemerera, ni uko uko iyo Nzira iri, iyo abo bita igice, ari ko nkorera Imana ya ba sogokuruza bacu, nemera vyose bifatanije n'ivyagezwe kandi vyanditswe mu vy'abavugishwa n'Imana;

15mfise ivyizigiro ku Mana bimwe n'ivyo aba na bo biteze, yuko hazoba ukuzuka kw'abagororotsi n'abagabitanya.

16Ni co gituma na ntaryo nkobereza kugira umutima utanyagiriza ikibi ku Mana canke ku bantu.

17Maze imyaka myinshi ishize, njanwayo no gushira ubwoko bwacu ivyo ubuntu, no gutanga ibimazi.

18Nkiri muri vyo bansanga mu rusengero nihumanuye, ata bantu nkoranije, ata n'urwamo ruriho. " Ariko hari Abayuda bamwe bavuye muri Asiya,

19ni bo bari bakwiye kuza hano imbere yawe no kundega, iyaba bafise ico bangaya.

20Canke na bano na bo ni bavuge icaha bambonyeko, aho nari mpagaze imbere y'abacamanza,

21kiretse ryoba rya jambo rimwe navuze n'ijwi rirenga mpagaze muri bo nti: "Ukuzuka kw' abapfuye ni kwo kumpagaritse muri izi manza imbere yanyu uwu musi. “

22Ariko Feliki, kuko yari azi neza ivyo Iyo Nzira ivyo ari vyo, arabibika ati: "Lusiya umukuru w'intwazangabo z'abasoda ni yaza, nzoca urubanza rw'amajambo yanyu. “

23Abarira intwazangabo y' abasoda ijana kumurinda ico amaso, no kutabuza n'umwe mu bagenzi kumukorera.

24Imisi mike ishize, Feliki azanana n'umugore wiwe Durusila w'Umuyudakazi, ahamagaza Pahulo, yumviriza ivyo avuga ku vyo ukwizera Kristo Yesu.

25Akiriko aravuga ivyo ukugororoka n'ivyo ukwirinda n'ivyo ubutungane azocibwa, Feliki acika intege, aramubarira ati: " "Ubu ni wigire, ni naronka uburyo bwiza nzogutumako. “

26Kandi yanaziga ko Pahulo yomuhera amahera; ico ni co camutera kwama amuhamagaza ngo bayage.

© 2007 Bible Society of Burundi.

27Imyaka ibiri ishize, Porukiyo Fesito akura Feliki. Maze Feliki agomvye kwikundisha Abayuda asiga Pahulo akiboshwe.

## Igitabo C' Ivyakozwe N'intumwa 25

1Nuko Fesito ashikiriye intara amara gatatu, araheza ava i Kayisariya aduga i Yerusalemu.

2Abaherezi bakuru n'abahambaye bo mu Bayuda bamuregako Pahulo, baramwinginga,

3bamusaba kubagirira neza kuri uwo, ngo amutumeko, aze i Yerusalemu, na bo baze bamwibundire bamutsinde mu nzira.

4Ariko Fesito abishura yuko Pahulo arindirwa i Kayisariya, kandi ubwiwe ko agiye kujayo vuba.

5Arababwira ati: "Nuko abakuru bo muri mwebwe ni bamanuke tujane, maze namba kuri uwo mugabo hari ikidakwiye, bakimurege. “

6Amaze muri bo imisi itarenga umunani canke icumi, aramanuka aja i Kayisariya; bukeye bw'aho yicara ku ntebe y'imanza avuga ko bazana Pahulo.

7Na we ashitse, Abayuda bamanutse bavuye i Yerusalemu baramukikiza, bamurega ibirego vyinshi bikomeye, ivyo badashobora kuronkera icagiriza.

8Pahulo ariregura ati: "Nta caha nakoze, ari ku vyagezwe vy'Abayuda, canke ku rusengero, canke kuri Kayisari. “

9Fesito agomvye kwikundiriza Abayuda, abaza Pahulo ati: "Wokwemera kuduga i Yerusalemu gucirirwayo urubanza rw'ivyo mu maso yanje? “

10Ariko Pahulo aramwishura ati: "Mpagaze aha imbere y'intebe y'imanza ishinzwe na Kayisari, ni ho nkwiye gucirwa urubanza. " Nta kibi nagiriye Abayuda, kandi nawe urabizi neza.

11Nuko namba naragabitanije, canke narakoze ibikwiye kunyicisha, sinanka gupfa; ariko namba ivyo aba bandega atari ko biri, nta muntu ashobora kubampa. Nzokwitwara kuri Kayisari.

12Fesito amaze kuja inama n'abacamanza, aramwishura ati: "Ko ugomvye kwitwara kuri Kayisari, imbere ya Kayisari ni ho uzoja. “

13Hashize imisi, umwami Agiripa na Berenike bashika i Kayisariya, baja kuramutsa Fesito.

14Bamazeyo imisi myinshi, Fesito ashira imbere y'umwami ivya Pahulo ati: "Hariho umuntu Feliki yasize ari imbohe.

15Aho nari i Yerusalemu abaherezi bakuru n'abakuru b'Abayuda bambariye ivyiwe, basaba ko ndamucira urubanza. “

© 2007 Bible Society of Burundi.

16 Ndabishura nti: "Si umugenzo w'Abaroma gutanga umuntu uwo ari we wese, umuregwa atabanje kuba kumwe n'abamureze imbonankubone, no kubona uburyo bwo kwiregura ibirego bamureze. “

17 Nuko bakoraniye hano, sinarinze guteba, ariko bukeye bw'aho nicara ku ntebe y'imanza, ndahamagaza uwo muntu.

18 Abarezi bavuye hasi, ntibamurega ikirego na kimwe co mu bibi nakeka;

19 ariko bamurega ibihari vyo mw'idini yabo, n'ivyo umuntu yitwa Yesu, yapfuye, uwo Pahulo yavuga ashimitse ko ari muzima.

20 Nanje nzazaniwe ingene nobaza ivyo ivyo, ndamubaza yuko agomba kuja i Yerusalemu, gucirirwayo urubanza rw'ivyo.

21 Ariko Pahulo asavye kurindwa kugira ngo azocirwe urubanza na Augusito, mvuga ko arindwa gushitsa aho nzomurungikira Kayisari.

22 Agiripa yishura Fesito ati: "Nanje nagomba kwumva uwo muntu. " Na we ati: "Ejo uzomwumva. “

23 Bukeye bw'aho, Agiripa na Berenike bazanana icubahiro cinshi, binjirana mw'ikoraniro ry'abashingantahe n'abakuru b'intwazangabo z'abasoda n'abahambaye bo muri ico gisagara; maze Fesito avuga ko bazana Pahulo.

24 Nuko Fesito aravuga ati: "Mwami Agiripa, namwe mwese abo turi kumwe hano, murabona uwu, uwo ishengero ry'Abayuda bose bansabira i Yerusalemu bo n'ino, basemerera ngo ntagikwiye kubaho. “

25 Ariko nsanga ntiyakoze igikwiye kumwicisha, kandi ubwiwe agomvye kwitwara kuri Augusito, nigira imigabo yo kumumurungikira.

26 None mbuze ijambo rimenyekanisha ivyiwe ryo kwandikira umwami wanje, ni co gitumye ndamuzana imbere yanyu, kandi canecane imbere yawe, mwami Agiripa, kugira ngo ni twamara kumusiguza, mbone ico kwandika.

27 Kuko ngira ngo n'ico ubwenge buke kurungika imbohe, sinerekane ibirego vyayo. "

## Igitabo C’ Ivyakozwe N’intumwa 26

1 Agiripa abarira Pahulo ati: "Uremerewe kwiregura. " Maze Pahulo agorora ukuboko, ariregura

2 ati: "Ivyo narezwe n'Abayuda vyose, mwami Agiripa, numva nezerewe ko ari wewe ngira ndavyiregureko uwu musi;

3 kandi canecane kuko uzi imigenzo n'impari vyo mu Bayuda vyose: ni co gitumye nkwinginga ngo wihangane, unyumvirize.

4 Ingeso zanje, uhereye mu buto bwanje, izo narukanye mu bwoko bwacu n'i Yerusalemu, Abayuda bose barazizi.

© 2007 Bible Society of Burundi.

5Kandi bokwemera kubishingira intahe, baranzi, uhereye mu bihe vya kera, yuko nari Umufarisayo wo mu muce urusha iyindi yo mw'idini yacu gushimikira imigenzo.

6None mpagaze ngo ncirwe urubanza, kuko nizigira kuzobona ivyo Imana yasezeraniye ba sogokuruza,

7ivyo ubwoko bwacu icumi na bubiri bwizigira kuzobona, bukorera Imana bushizeko umwete mwinshi ku murango no mw'ijoro. Kandi ni kubwo ivyo vyizigiro ndezwe n'Abayuda, databuja!

8Ni igiki gituma mugira ngo ni ikintu kitoruha cemerwa ko Imana izura abapfuye?

9Nanje ubwanje nahora niyumvira muri jewe yuko nkwiye gukora vyinshi birwanya izina rya Yesu Umunyanazareti.

10Kandi ivyo narabikora nyene ndi i Yerusalemu, ngashira abera benshi mu mabohero, mpawe ubushobozi n'abaherezi bakuru, kandi aho babica, nanje nishira mu bemera ko bicwa.

11No mu nsengero z'Abayuda yose nabahana kenshi, nkagerageza cane kubatukisha Yesu; kandi kuko nasazwa cane ndabazira, narabatuza no gushitsa mu bisagara vy'abanyamahanga.

12Ngikora ivyo, nja i Damasiko mpawe ubushobozi ndungitswe n'abaherezi bakuru.

13Nuko databuja, nkigenda mu mashoka, mbona umuco uvuye mw'ijuru, urusha uko izuba rica ibibatsi, unkayanganira irya n'ino, twe n'abo tugendanye.

14Twese twikubise hasi, numva ijwi rimbwira mu rurimi rw'Igiheburayo riti: "Sawuli, Sawuli, umpigira iki? Erega birakugoye gutera imigere ku mihunda. “

15Nanje ndabaza nti: "Uri nde ga Mwami? " Umwami aranyishura ati: "Ndi Yesu, uwo uriko urahiga. “

16Ariko va hasi, hagarara n'ibirenge vyawe, kuko igitumye nkwiyereka, ari ukugira ngo ngutoranye nkugire umukozi wanje n'icabona co gushingira intahe ivyo umbonanye, n'ivyo nzokwiyerekeramwo;

17ndagukize abo muri ubu bwoko bo n'abanyamahanga, ni bo ndagutumyeko,

18kubahumura amaso kugira ngo bahindukire bave mu mwiza baje mu muco, bave no mu bubasha bwa Satani baje ku Mana, bateko baharirwe ivyaha vyabo, baraganwe n'abejejwe n'ukunyizera.

19Nuko, mwami Agiripa, sinanka kwumvira ivyo neretswe vyavuye mw'ijuru.

20Ariko nabanje kubwira abo i Damasiko hanyuma abo i Yerusalemu, n'abo mu gihugu cose c'i Yudaya, n'abanyamahanga na bo, yuko bakwiye kwihana, no guhindukirira Imana, bakore ibikorwa bikwiranye n'ukwihana.

21Ni co catumye Abayuda bamfatira mu rusengero, bakageza kunyica.

© 2007 Bible Society of Burundi.

22None nabonye gutabarwa kwavuye ku Mana, ndacahagaze kugeza n'ubu, nshingira intahe aboroshe n'abahambaye, nta kindi mvuga atari ivyo abavugishwa n'Imana na Mose bavuze ko bizoba,

23yuko Kristo atazobura kubabazwa, kandi ko ari we azobanza kuzuka mu bapfuye, no kubwira ubwoko bwacu n'abanyamahanga ubutumwa bw'umuco.

24Aciregura atyo, Fesito avuga n'ijwi rirenga ati: "Erega Pahulo urasaze; ubwenge bwawe bwinshi buragushajije. “

25Pahulo aramwishura ati: "Sinsaze, Fesito umwubahwa, ariko mvuga amajambo y'ukuri kandi aroranye. “

26Umwami arazi ivyo neza, kandi ndamubarira nshize amanga; kuko nzi yuko ata na kimwe muri ivyo ahishijwe, kuko ivyo bitakorewe mu mfuruka.

27Mwami Agiripa, uremeye ivyo abavugishwa n'Imana? Ndazi yuko uvyemeye.

28Agiripa yishura Pahulo ati: "Unkwegesha ivyo bike ngo umpindure Umukristo? “

29Pahulo ati: "Ndasaba Imana ari bike ari vyinshi, yuko atoba wewe wenyene, ariko n'abanyumva uwu musi mwese, ko vyobahindura nkanje, ukuye iyi minyororo. “

30Umwami ahagurukana n'icegera ca Kayisari na Berenike, n'abari bicaranye na we;

31maze basohotse baravugana bati: "Nta co uwu muntu yakoze gikwiye kumwicisha canke kumubohesha. “

32Agiripa abarira Fesito ati: "Uwu muntu aba arekuwe, iyo ataba yari agomvye kuzokwitwara kuri Kayisari. "

## Igitabo C' Ivyakozwe N'intumwa 27

1Bamaze gushinga ngo tujabuke tuje muri Italiya, Pahulo n'izindi mbohe babaha intwazangabo z'abasoda ijana yitwa Yuliyo, wo mu ngabo za Augusito.

2Dutambukira mu bwato bwavuye muri Aduramutiyo, bugira bugende bujabukiranya ahantu ho muri Asiya hahereye ku kiyaga, tuvayo turi kumwe na Arisitariko Umunyamakedoniya w'i Tesalonike.

3Bukeye bw'aho dufata i Sidoni, Yuliyo agirira Pahulo neza, amukundira kugendera abagenzi ngo bamuzimane.

4Tuvayo, duca musi y'i Kupuro ngo tuhikinge umuyaga, kuko wari uduturutse imbere.

5Tujabutse ikiyaga gihereranye n'i Kilikiya n'i Pamfiliya, dufata mu gisagara c'i Lukiya citwa Mura.

6Iyo ntwazangabo y'abasoda ijana ahasanga ubwato buvuye muri Alekisanderiya buja muri Italiya, adushiramwo.

© 2007 Bible Society of Burundi.

7 Tumaze imisi myinshi tugenda buhoro, dushika hafi y'i Kinido bitugoye cane, maze umuyaga utubujije duca musi y'i Kirete, imbere y'i Salumone, ngo tuhikinge umuyaga.

8 Tujana inkengera bitugoye cane, dushika ahantu hitwa Vyambuvyiza, hafi y'igisagara citwa Laseya.

9 Hashize igihe kirekire, kandi kujabuka kubaye irinde, kuko igihe co kwisonzesha cari gishize, Pahulo arabahanura,

10 arababarira ati Yemwe bagabo, ndabonye yuko uru rugendo rugira rubemwo ivyago n'ubuhombe bwinshi, si ivyo ubwato n'ibirimwo gusa, ariko n'ivyo amagara yacu na yo.

11 Ariko, intwazangabo z'abasoda yumvira uwutumbereza ubwato na nyene bwo kurusha ivyo Pahulo avuze.

12 Kandi kuko icambu atari ciza co kugumamwo kuhamara urushana, abenshi babagira inama yo kuvayo, ngo bishobotse bashike i Foyinike, kuba ari ho bamara agatasi, hari icambu c'i Kirete, cerekeye hagati yo mu buraruko no mu buseruko, kandi hagati yo mu buseruko no mu bumanuko.

13 Maze umuyaga uturutse mu bumanuko uhuhuse buhorobuhoro, bibwiye ko baronse ico bagomba, bazitura ubwato, bagenda bajana inkengera hafi cane y'i Kirete.

14 Ariko igihe kitari kinini gishize, hatera umuyaga w'igihuhuta witwa Ewurakulo, uturutse kuri ico kizinga.

15 Ubwato bumaze guhuhwa n'uwo muyaga, butagishobora gutumbera umuyaga, turabureka burakubebwa.

16 Duca musi y'akazinga kitwa Kilawuda, tuhikinga umuyaga, tubona uko tuboha akato k'inyuma bitugoye cane;

17 bamaze kugaterura, bakira ibitsibo vy'integakiba, babicisha musi y'ubwato, barabuboha, kandi kuko batinya gusukwa ku musenyi ushaya witwa Suriti, bamanura igihuzu kigendesha ubwato, bagenda batyo bakubebwa.

18 Tuzungagizwa cane n'igihuhuta, bukeye bw'aho bata imitwaro mu kiyaga.

19 Kw'igenekerezo rya gatatu batesha amaboko yabo ibikoresho vyo mu bwato.

20 Kandi izuba n'inyenyeri bimaze imisi myinshi bitaboneka, turi mu gihuhuta cinshi gityo, twihebura rwose ko ata wuzokira.

21 Bamaze igihe kirekire batakirya, Pahulo ahagarara hagati muri bo, arababarira ati: "Yemwe bagabo, mwari mukwiye kunyumvira, ntimuve i Kirete, ngo mugire ibi vyago n'ubuhombe. “

22 Kandi none ndabaremesha, ni muhumure, kuko muri mwebwe hatazopfa n'umwe, atari ubwato.

© 2007 Bible Society of Burundi.

23Kuko muri iri joro umumarayika w'Imana, ndi uwayo, kandi ni yo nkorera, yahagaze i ruhande yanje,

24arambwira ati: "Nta co utinya, Pahulo; ukwiye guhagarara imbere ya Kayisari, kandi ehe Imana ikwemereye n'abo mugendanye bose. “

25Nuko ni muhumure, yemwe bagabo, kuko nizeye Imana, yuko bizoba nk'uko nabariwe.

26Ariko hari ikizinga dukwiye gusukwako.

27Ijoro ry'icumi na kane rishitse, dukubebwa irya n'ino mu kiyaga ca Adiriya; maze nko mu gicugu abagendesha ubwato bakeka ko hari igihugu begereye.

28Bagera uburebure bw'amazi yo hasi, babona ingero mirongo ibiri; hashize umwanya muto bongera kugera, babona ingero icumi na zitanu.

29Kandi kuko batinya gusukwa ahantu h'amabuye baterera mu mazi ivyuma bine vyo kuzirika ubwato babicishije mu mutwe w'inyuma; bifuza ko buca.

30Maze abasoza ubwato barondeye ingene bobuvamwo, bururukiriza ka kato mu kiyaga, bibonekesha nk'abagomba kuzirikisha ivyuma umutwe w'imbere.

31Pahulo abarira ya ntwazangabo y'abasoda ijana, hamwe n'abasoda na bo ati: "Aba ni bataguma mu bwato ntimushobora gukira. “

32Maze abasoda baca imigozi ifashe akato, ngo bakareke gakoroke.

33Bugira buce Pahulo arabinginga bose ngo barye ati: "None uwu musi ni uwugira icumi na kane mukirorereye mutarya, ata co mutamira.

34Nuko ndabinginze, ni murabe utwo murya; kuko ari vyo vyobakiza, kandi ntihazohara agashatsi na kamwe ko ku mitwe yanyu. " “

35Amaze kuvuga ivyo, yakira umutsima, ashimira Imana imbere yabo bose, arawumanyagura, atangura kurya.

36Bose basubiza umutima mu nda, na bo bararya.

37Kandi twese abari mu bwato twari abantu amajana abiri na mirongo irindwi na batandatu.

38Bamaze guhaga, baremurura ubwato, bata ingano mu kiyaga.

39Ijoro rikeye, ntibamenya ico gihugu, ariko babonye ikigobe kirimwo umusenyi, baja inama yuko boshobora gushikanaho ubwato.

40Bazitura imigozi ifashe ivyuma biziritse ubwato, babirekera mu kuzimu; bariko barabikora, batenzura imigozi yari igumije ingafe zihindukiza ubwato, baduza igihuzu c'imbere kibugendesha ngo gihuhwe n'umuyaga, batumbereza ku musenyi.

© 2007 Bible Society of Burundi.

41Ariko bashitse mw'ihuriro ry'amazi, basekura ubwato ku gataka, maze umutwe wabwo w'imbere winjiramwo, urahamangira, uwo inyuma na wo utangura kumenagurwa n'inkomezi z'imipfunda. “

42Inama y' abasoda kwari uko bokwica imbohe, kugira ngo ntihagire uwo muri zo yokwoga agatoroka.

43Ariko ya ntwazangabo y'abasoda, agomvye gukiza Pahulo, ababuza iyo nama yabo, avuga yuko abazi kwoga bokwisuka mu mazi, kugira ngo babanze gushika ku nkombe,

44abandi na bo, bamwe bagende ku mbaho, abandi ku bindi bivuye mu bwato. Nuko bagenza batyo, bashika ku nkombe bose, barakira.

## Igitabo C’ Ivyakozwe N’intumwa 28

1Tumaze gukira, tumenya ico kizinga yuko citwa Melita.

2Abanyamahanga badebagura baratugirira neza cane bitangaje, baducanira umuriro kubwo imvura n'imbeho vyariho, batwakira twese.

3Ariko Pahulo amaze gusenya umuganda w'inkwi, arazikomanya, inzoka iva mu muriro, imukomora ku kuboko.

4Abo badebaguzi babonye ico gikoko cenena ku kuboko kwiwe, baravugana bati: "Uwu muntu ntabuze kuba umwicanyi; kandi naho yakize ikiyaga, Iyidaca urwa nkunzi ntimukundiye ko abaho. “

5Ariko akunkumurira ico gikoko mu muriro, ntiyagira ico aba.

6Ba bandi barereka ko avyimba, canke ko agwa bukumbi; ariko bamara umwanya munini babirereste, babonye ata co abaye, barahindura bati: "Ni Imana. “

7Hafi y'aho hantu hari amatongo y'umukuru w'ico kizinga, yitwa Pubiliyo aratwakira, atuzimana neza imisi itatu.

8Se wa Pubiliyo yari arwaye inyonko kandi agacibwamwo amaraso. Maze Pahulo yinjira i we, arasenga; amurambikako ibiganza, aramukiza.

9Ivyo bibaye, abandi bari n'indwara bo muri ico kizinga baraza, arazibakiza.

10Baduha icubahiro mu buryo bwinshi; maze mu gihe co kujabuka kwacu bashira mu bwato ivyo dukenye.

11Tuhamaze amezi atatu, tuvayo mu bwato bwari bwavuye muri Alekisanderiya, bwari bumaze iyo misi y'urushana ku kizinga. Ikimenyetso cabwo cari Imana z'Amahasa.

12Dufata i Surakusa, tuhamara imisi itatu.

13Turahava, turazunguruka, dufata i Regiyo. Hashize umusi umwe umuyaga uturutse mu bumanuko urahuhuta, tugenda imisi ibiri, dufata i Puteyoli.

© 2007 Bible Society of Burundi.

14 Tuhasanga abavukanyi bamwe, baratwinginga ngo tumarane na bo imisi indwi; uko ni ko twashitse i Roma.

15 Abavukanyi b'i Roma bumvise inkuru yacu, baza kudusanganirira ahitwa Akaguriro ka Apiyo, n'ahitwa Amaduka Atatu. Pahulo ababonye ashima Imana, umutima urarema. “

16 Tumaze gushika Roma, intwazangabo z'abasoda ijana ashikiriza imbohe intwazangabo z' abasoda bahora bacungera kwa Kayisari, ariko bakundira Pahulo kuba ukwiwe, ari kumwe n'umusoda amurinda.

17 Imisi itatu iheze ahamagara abakuru bo mu Bayuda abakoraniriza hamwe; bamaze gukorana, arababarira ati: " "Bagabo bavukanyi, naho ntagize ikibi nakoze ku bwoko bwacu canke ku migenzo ya ba sogokuruza, bampaye Abaroma ndi imbohe, bamvanye i Yerusalemu. “

18 Na bo bamaze kuncunaguza, bashaka kundekura, kuko ata nyanduruko yambonetseko yo kunyicisha.

19 Ariko Abayuda batagaye, numva nkwiye kwitwara kuri Kayisari; ariko si uko mfise ico ndega ubwoko bwacu.

20 Ivyo ni vyo nabatumiyeko ngo tuvugane tubonana; kuko ivyo Abisirayeli bizigira kuzobona ari vyo vyatumye mboheshwa uwu munyororo.

21 Na bo baramwishura bati: "Nta vyete twaronse bivuye i Yudaya bivuga ivyawe, kandi mu bavukanyi baje nta watubariye inkuru mbi yawe, canke ngo akuvuge nabi. “

22 Ariko turagomba kwumva ivyo wiyumvira, kuko ico gice tuzi yuko bakivuga nabi hose.

23 Basezerana na we umusi, baza iyo ari ari benshi, mu nzu bamuhaye, arabibasobanurira, ashingira intahe ivyo ubwami bw' Imana, abemeza ivya Yesu, abikuye mu vyagezwe vya Mose no mu vyo abavugishwa n'Imana, ahera mu gitondo ashitsa ku mugoroba.

24 Maze bamwe bemera ivyo avuze, abandi ntibavyemera.

25 Batemeranije ubwabo barataha, Pahulo asubiye kuvuga ijambo rimwe ati: "Ivyo Mpwemu Yera yabaririye ba sogokuruza banyu mu kanwa k'uwavugishwa n'Imana Yesaya, yabivuze neza,

26 ati: 'Ja kuri ubwo bwoko ' Uti: "Kwumva muzokwumva, ariko ntimuzoruha mubitahura; Kuraba muzoraba, ariko ntimuzoruha muvyihweza.

27 Kuko umutima w'ubu bwoko ucuramye, Amatwi yabo akaba ari bihurugutwi, Amaso yabo bakayahumiriza. Ngo ntibarabishe amaso, Ntibumvishe amatwi, Ntibatahurishe imitima, Ngo bahindukire, Ndabakize.

28 Nuko mumenye yuko ako gakiza k'Imana karungitswe ku banyamahanga, kandi abo bazokwumva. "

© 2007 Bible Society of Burundi.

"[ 29Amaze kuvuga atyo, Abayuda bagenda baharirizanya bikomeye. ]

30Amara mu nzu yiwe yirihira imyaka ibiri ikwiye, yama yakira abaje kumugendera bose,

31akabahanura mu vyo ubwami bw'Imana, akigisha ivyo Umwami Yesu Kristo, ashize amanga rwose, ata wumubuza."

© 2007 Bible Society of Burundi.

# Abaroma

## Abaroma 1

1Jewe Pahulo umushumba wa Yesu Kristo nahamagariwe ubutumwa bw'Imana.

2Imana yabubasezeraniye kera ibivugiye mu bo yavugisha na bo bakabwandika mu vyanditswe vyera.

3Buvuga ivyo Umwana wayo yavutse mu buryo bw'umuntu mu ruvyaro rwa Dawidi.

4Ariko mu buryo bwa Mpwemu Yera, yerekanywe ko ari Umwana w'Imana ukuzuka kwiwe yakwerekanishije ubushobozi, uwo ni Yesu Kristo Umwami wacu.

5Twaronse ubuntu n'ibanga ryo kuba intumwa ku bwiwe kugira ngo mu mahanga yose habemwo abumvira Imana, babiheshwa no kwizera.

6Kandi namwe muri muri bo, mwahamagariwe kuba aba Yesu Kristo.

7Ndabandikiye mwese muri i Roma mukundwa n'Imana, mwahamagariwe kuba abera. Ubuntu n'amahoro bubabemwo, biva ku Mana, Data wa twese, no ku Mwami Yesu Kristo bibabemwo.

8Irya mbere, ndashimiye Imana yanje muri Yesu Kristo ku bwanyu mwese, kuko inkuru y'ukwizera kwanyu ikwiye mw'isi yose.

9Imana, nkorera mu mutima wanje mvuga ubutumwa bwiza bw'Umwana wayo, ni yo ntanzeko icabona yuko ndabahoza mu kanwa ubudasiba.

10Imisi yose uko nsenze, nsaba ngo ubu hoho ibigomvye Imana yemere kunzana amahoro no kunzana i wanyu. “

11Kuko nifuza kubabona, kugira ngo ndabahe ingabire y'impwemu, ibaremeshe;

12ni kwo guhumurizanya namwe, mpumurizwe n'ukwizera kwanyu, namwe muhumurizwe n'ukwanje.

13Kandi bavukanyi, singomba ko mutamenya yuko kenshi nari mfise imigabo yo kuza i wanyu, kugira ngo namwe ndabamuremwo imbuto, nk'uko nazibonye mu yandi mahanga, ariko ngira ikimbuza kugeza n'ubu.

14Mfitiye umwenda Abagiriki n'abanyamahanga badebagura, abanyabwenge bo n'ibijuju.

15Ni co gituma jeho kubwanje niteguye kubabwira ubutumwa bwiza namwe muri i Roma.

16Ubutumwa bwiza ntibuntera isoni kuko ari ubushobozi bw' Imana, buzanira uwizera wese agakiza, uhereye ku Muyuda ukageza ku Mugiriki.

17Kuko muri bwo ari ho ukugororoka kuva ku Mana guhishurwa, guheshwa n'ukwizera kukagwiza ukwizera, nk'uko vyanditswe," ngo umugororotsi azobeshwaho n'ukwizera.

© 2007 Bible Society of Burundi.

18Ishavu ry'Imana ryarahishuwe, rivuye mw'ijuru, irisuka ku bayigarariza n'abagabitanya bakayongesha ukuri ukugabitanya kwabo.

19Kuko ivyo umuntu yomenya vy'Imana vyerekanwa muri bo, Imana ari yo yabiberetse.

20Mbere kuva isi ikiremwa ivyo Imana bitunganye bitabonwa n'amaso ari vyo bushobozi bwayo budashira be n'ubumana bwayo, biragaragara; bimenyekanishwa kuko bibonekera mu vyo yaremye, kugira ngo ntibagire ico bireguza.

21Kuko bamenye Imana ntibayubahe nk' Imana, ntibayishime; ariko bacitse abiyumvira ivyo ubusa, imitima yabo y'ubujuju icura umwiza.

22Biyise abanyabwenge bacika ibipfu.

23Icubahiro c'Imana idapfa baragikaba no gusenge ibishushanyo bisa n'umuntu apfa, ivyo ibiguruka, ivyo ibigenza amaguru ane n'ivyo ibikwega inda hasi.

24Ni co catumye Imana ibaheba ngo bakore ibiteye isoni, bumvire ivyo imitima yabo yifuza, bonone imibiri yabo,

25kuko ukuri kw'Imana bagukavye ibinyoma, bagasenga bagakorera icaremwe, bakakirutisha Iyakiremye, ni yo ikwiye gushimwa ibihe bidashira. Amina.

26Ni co catumye Imana ibaheba ngo bipfuze ivyonona; kuko abagore babo bahinduye ukundi ico imibiri yabo yaremewe bayikoresha ico itaremewe.

27Kandi n'abagabo ni uko, baretse kugirira abagore ivyo imibiri yabo yaremewe, bashuha babegukana, abagabo bagirira abandi bagabo ibiteye isoni, kandi mu mibiri yabo bahabwa ingero zikwiranye n'ikosa ryabo.

28Kandi nk'uko banse kumenya Imana mu mitima yabo, ni ko Imana yabahevye ngo bagire imitima y' akahebwe, bakore ibitabereye.

29Buzuye ukugabitanya kwose, ukugira nabi, ukwifuza n'urwanko rw'ubusa. Buzuye igono, ubwicanyi, ugutongana, ubugunge, ukwitamba ku muvyimba; abaneguranira mu vyongorerano,

30abavuga abandi nabi, abanka Imana, abatukana, abibona, abirarira, abigenera ibibi, abatumvira abavyeyi,

31ibipfu, abava mw'isezerano, abadakunda n'ababo n'imburakigongwe.

32Abo, naho bamenye urubanza Imana ica, yuko abakora ibisa bityo bakwiye gupfa, ntibabikora gusa, ariko batako bagashima n'ababikora.

## Abaroma 2

1Ni co gituma utagira ico wireguza, wewe muntu wese uhinyura uwundi. Ko uhinyura uwundi, uba witsindishije; kuko wewe umuhinyura ukora nk'ivyo nawe nyene akora.

2Ariko turazi yuko urubanza Imana icira abakora ibisa bityo ari urwo ukuri.

© 2007 Bible Society of Burundi.

3 Wewe ga muntu, uhinyura abakora ibisa bityo, nawe ubikora, mbega wiyumvira
yuko uzokira urubanza Imana ica?

4 canke ukengera itunga ryo kugira neza kwayo, iryo imbabazi zayo n'iryo
ukwihangana kwayo? Ntuzi yuko kugira neza kw'Imana kugushikana ku kwihana?

5 Ariko kuko uwufise umutima ukomantaye utihana, wirindiriza ishavu ry'inkazi
rizoza ku musi wo kuraka, aho imanza zibereye z'Imana zizohishurirwa.

6 Izokwishura umuntu wese ibikwiranye n'ivyo yakoze.

7 Abarondera ubwiza n'icubahiro no kudapfa, bahora bakora ivyiza bihanganye,
izobishura ubugingo budashira.

8 Ariko ku bakebana ntibumvire ivyo ukuri, ariko bakumvira ukugabitanya, hazoba
ishavu no guhambarirwa

9 n'amarushwa n'ivyago ku bugingo bw'umuntu wese akora ibibi, uhereye ku Muyuda,
ukageza ku Mugiriki.

10 Ariko ubwiza n'icubahiro n'amahoro bizoba ku muntu wese akora ivyiza, uhereye
ku Muyuda, ukageza ku Mugiriki,

11 kuko Imana itarobanura abantu ku cubahiro.

12 Abakoze ivyaha bose, batazi ivyagezwe, bazohona ivyagezwe bitarinze
kwiyumvirwa; kandi abakoze ivyaha bose bazi ivyagezwe bazotsindishwa
n'ivyagezwe.

13 Kuko abumvise ivyagezwe atari bo bagororoka imbere y'Imana, abavyumviye ni bo
bazotsindanishirizwa.

14 Abanyamahanga badafise ivyagezwe n'Imana iyo bakoze ibibwirizwa na vyo ku
bwabo, baba bihindukiye ivyagezwe naho batabifise.

15 Berekana ko uburyo bakora bakurikije ivyagezwe, vyanditswe mu mitima yabo, ijwi
ryo mu mitima yabo rirabishingira intahe ari icabona cavyo, kandi ivyo biyumvira
bifatanya kubarega canke kubaregura.

16 Ni ko bizoba ku musi Imana izocira urubanza muri Yesu Kristo ivyo abantu bagize
amabanga, nk'uko ubutumwa bwiza nahawe buvuga.

17 Ko witwa Umuyuda, ukishimira ivyagezwe, ukirata Imana,

18 ukamenya ivyo igomba, ukarobanura ibidahwana, kuko wigishijwe ivyo ivyagezwe,

19 ukishima yuko ushobora kujana impumyi, kandi ko uri umuco w'abari mu mwiza,

20 n'umuhanuzi w'abanyabwenge buke, n'umwigisha w'utwana, kuko mu vyagezwe
ufise icerekana ubwenge n'ukuri.

21 Nuko wewe wigisha abandi, mbega ntiwiyigisha? Wewe wihaniza abiba, weho
ntiwiba?

© 2007 Bible Society of Burundi.

22 Wewe ubabuza gusambana, weho ntusambana? Wewe wanka ibishushanyo vy'ibigirwamana, weho ntiwiba ivyo mu nsengero zavyo?

23 Wewe wirata ivyagezwe, mbega ntugayisha Imana kuko ubicumurako?

24 Izina ry'Imana muritukisha mu mahanga, nk'uko vyanditswe.

25 Kuko guhimburwa igikoba c'ubugabo kugira ico kukumarira, iyo witondeye ivyagezwe; ariko iyo ucumuye ku vyagezwe, guhimbura igikoba c'ubugabo kwawe kuba gucitse ukudahimburwa igikoba c'ubugabo.

26 None uwutakebwe igikoba c'ubugabo ni yitondera ibibwirijwe n'ivyagezwe, mbega kudahimburwa igikoba c'ubugabo kwiwe ntikuzomuharurwako nko guhimburwa igikoba c'ubugabo?

27 Kandi uwutahimbuwe igikoba c'ubugabo ku mubiri ni yitondera ivyagezwe, azogutsindisha, wewe ucumura ku vyagezwe, ufise inyuguti zavyo no guhimburwa igikoba c'ubugabo.

28 Kuko Umuyuda wo ku rukoba atari we Muyuda; kandi guhimbura igikoba c'ubugabo kwo ku mubiri atari kwo guhimburwa igikoba c'ubugabo.

29 Ariko Umuyuda wo mu mutima ni we Muyuda, kandi guhimburwa igikoba c'ubugabo ni uko umutima, n'ukwo mu buryo bw'impwemu, atari ukwo mu buryo bw'inyuguti; uwumeze atyo ntashimwa n'abantu, ariko ashimwa n' Imana.

## Abaroma 3

1 None Umuyuda aruta abandi ate? Canke guhimburwa igikoba c'ubugabo kumara iki?

2 Arabibarusha vyose. Ica mbere, ni uko Abayuda babikijwe ivyavuzwe n'Imana.

3 Tuvuge iki? Naho bamwe batizeye, mbega kutizera kwabo kuzohindura ubusa ivyo Imana yizigiweko?

4 Oya namba. Ariko Imana iboneke ko ari inyakuri, n'iyo umuntu wese yoba ari umubeshi; nk'uko handitswe, ngo Kugira ngo mu majambo yawe uboneke ko ugororotse, Kandi utsinde ni washika mu rubanza. “

5 Ariko namba ukugabitanya kwacu kwashimagije ukugororoka kw' Imana, tuvuge iki? Mbega Imana iragabitanya, kuko iduhanisha ishavu ryayo? Ndabivuze nk'imvugo y'abantu.

6 Eka na mba! Iyo biba bityo, Imana yociriye abari mw'isi urubanza ite?

7 Ariko namba ibinyoma vyanje vyatumye ukuri kw'Imana kurushiriza kwerekanwa, bikayitera icubahiro, ni igiki gituma nanje ncirwa urubanza nk'umunyavyaha?

8 Kandi ni igiki kitubuza gukora ibibi kugira ngo ivyiza bibeho? (nk'uko batubeshera bakanavuga ko twigisha ibibi). Abakora batyo bazocirwa urubanza bakwiranye.

© 2007 Bible Society of Burundi.

9Nuko tuvuge iki? Mbega turuta abandi? Oya, ntitubaruta na gatoya, kuko tumaze kwagiriza Abayuda n'Abagiriki bose ko baganzwa n'icaha;

10nk'uko handitswe," ngo Nta wugororoka, nta n'umwe,

11Nta wutahura, Nta wurondera Imana.

12Barazimiye iyo bava bakagera, bose bacitse imburakimazi, Nta wukora ivyiza, eka nta n'umwe.

13Imihogo yabo n'imva zirangaye, Bahendahendanishije indimi zabo; Ubumara bw'inzoka buri mu binyigishi vyabo.

14Akanwa kabo kuzuye ukuvuma no kujingitwa,

15Ibirenge vyabo vyihutira kuvisha amaraso.

16Guhonya n'ugusinzikaza biri mu nzira zabo,

17Inzira y'amahoro ntibayimenye;

18Nta gutinya Imana kuri mu maso yabo.

19Ariko turazi yuko ivyo ivyagezwe bivuga vyose bibibwira abaganzwa na vyo, kugira ngo akanwa kose kazibwe, kandi abari mw'isi bose babe abo gutsindwa n'urubanza imbere y'Imana;

20kuko imbere yayo ata muntu azoba umwere kubwo ibikorwa vyubahiriza ivyagezwe, kuko ivyagezwe ari vyo bimenyekanisha icaha.

21Ariko noneho ivyagezwe bitariho, ukugororoka kuva ku Mana kurahishuwe, gushingirwa intahe n'ivyagezwe n'ivyo abavugishwa n'Imana,

22ni ukugororoka kuva ku Mana, kuzanwa no kwizera Yesu Kristo, kugira ngo abizeye bose baguhabwe. Kuko ata tandukaniro;

23bose bakoze ivyaha, ntibashikira ubwiza bw'Imana.

24Ubuntu bwayo bubagira abera, ibibahereye ubusa, ku bwo gucungurwa kubonerwa muri Kristo Yesu.

25Uwo Imana yashizeho kuba indishi y'uwizera, ayigirwa n'amaraso yiwe, kugira ngo Imana yerekane ukugororoka kwayo, kuko yirengagije ivyaha vyakozwe kera ku bwo imbabazi zayo;

26no kugira ngo yerekane ukugororoka kwayo muri iki gihe, ngo ibe Iyigororoka n'Iyigira abantu abera uwizeye Yesu.

27None rero ukwihaya kuri hehe? Kwarabujijwe. Kwabujijwe n'ivyagezwe ki? Mbega ni ivyo ibikorwa? Haba na mba; kwabujijwe n'ivyo ukwizera.

28Ni co gituma twiyumvira yuko umuntu agirwa umwere n'ukwizera, ibikorwa vyubahiriza ivyagezwe bitarinze kwiyumvirwa.

© 2007 Bible Society of Burundi.

29Canke Imana ni iyo Abayuda bonyene? Mbega si iyo abanyamahanga na bo? Ego me, ni iyo abanyamahanga na bo.

30Ko Imana ari imwe, izobagira abere abahimbuwe igikoba c'ubugabo ku bwo ukwizera, kandi izobagira abere batahimbuwe igikoba c'ubugabo babiheshwa n'ukwizera.

31Mbega none ivyagezwe tubihinduza ubusa ukwizera? Eka na mba; ushime turabitsindagiye.

## Abaroma 4

1None rero, ico twovuga yuko Aburahamu sogokuruza ku mubiri yaronse ni igiki?

2Iyo Aburahamu agirwa umwere kubwo ibikorwa, aba afise ico yihaya. Ariko imbere y'Imana nta co afise.

3Ivyanditswe bivuga iki? Bivuga ngo Aburahamu yizeye Imana, ibimuharurako nk'ukugororoka.

4Yamara uwukora, ingero yiwe ntiharurwa nk'ubuntu iharurwa nk'inyishu.

5Ariko uwudakora, akizera Iyigira abatayubashe abere, ukwizera kwiwe rurwa nk'ukugororoka.

6Nk'uko Dawidi na we yavuze ubuhirwe bw'umuntu uwo Imana iharura nk'uwugororotse, atari kubwo ibikorwa

7ati: "Harahiriwe abahariwe ibigabitanyo vyabo," kandi ivyaha vyabo bigahishwa,

8Harahiriwe umuntu Uhoraho atazoharurako icaha.

9Mbega ubwo buhirwe buvugwa ku bahimbuwe igikoba c'ubugabo bonyene, canke ku batahimbuwe igikoba c'ubugabo na bo? Kuko tuvuga tuti: "Ukwizera kwaharuwe kuri Aburahamu nk'ukugororoka.”

10Kwaharuwe ryari? Yari yarahimbuwe igikoba c'ubugabo, canke ntiyaribwagihimburwe? Ico gihe si uko yari amaze guhimburwa igikoba c'ubugabo ariko ntiyaribwagihimburwe.

11Kandi ahabwa ikimenyetso, ni kwo guhimburwa igikoba co ku mutwe w'igihimba c'irondoka, kuba ikimenyetso c'ukugororoka kwavuye kuri kwa kwizera yarafise atarahimburwa igikoba c'ubugabo, kugira ngo abe sekuruza w'abizera bose batahimbuwe igikoba c'ubugabo, ngo bibaharurweko ukugororoka;

12kandi abe na sekuruza w'abahimbuwe igikoba c'ubugabo, batahimbuwe igikoba c'ubugabo gusa, ariko bagera ikirenge mu c'ukwo kwizera kwa sogokuruza Aburahamu, ukwo yarafise, atarahimburwa igikoba co ku mutwe w'igihimba c'irondoka.

13Kuko atari kubwo ivyagezwe Aburahamu yasezeraniwe canke uruvyaro rwiwe, yuko azoragwa isi yose, ariko ni kubwo ukugororoka kuva ku kwizera.

© 2007 Bible Society of Burundi.

14Abizigira ivyagezwe iyo baba ari bo baragwa, ukwizera kuba kwarahindutse ubusa, ivyasezeranywe bikaba bititutse.

15Kuko ivyagezwe bizana ishavu, ariko aho ivyagezwe bitari, nta gicumuro kiba kiriho.

16Ni co gituma abaragwa babihawe kubwo kwizera ngo bibe ivyo bahawe ku buntu kugira ngo ivyasezeraniwe uruvyaro rwa Aburahamu bibe ivya bose, bitari ivyo abaganzwa n'ivyagezwe gusa; ariko ngo bibe n'ivyabaganzwa n'ukwizera kwa Aburahamu, sogokuruza wacu twese.

17Nakugize sekuruza w'amahanga menshi. Imbere y'Imana yacu yizeye ari yo izura abapfuye ikita n'ibitariho nk'ibiriho; ni we Sogokuruza wacu twese.

18Aburahamu yizera yizigiye ibitokwizigiwe, ngo abe sekuruza w'amahanga menshi, nk'uko vyavuzwe, ngo uruvyaro rwawe ni ko ruzongana.

19Kandi ntiyagabanukako ukwizera, yitegereje umubiri wiwe umaze kuba akaheze, kuko yari amaze imyaka nk'ijana y'amavuka yiwe, na Sara yari yaraciye.

20Ariko yiyumviriye ico Imana yamusezeraniye, ntiyakekeranishwa no kutizera, ariko aremeshwa cane no kwizera, ahesha Imana icubahiro,

21amenya neza adakekeranya yuko ico yasezeranye ishobora no kugikora.

22Ni co catumye bimuharurwako nk'ukugororoka.

23Ariko ntivyandikiwe we wenyene yuko vyamuharuweko nk'ukugororoka,

24ariko no kubwacu, bizoduharurwako nka kwo, kuko twizeye Iyazuye Yesu Umwami wacu imukuye mu bapfuye,

25yatangiwe ibigabitanyo vyacu, akazurwa kugira ngo tugirwe abera.

## Abaroma 5

1None rero, ko twagizwe abera n'ukwizera, dufise amahoro ku Mana ku bwo Umwami wacu Yesu Kristo,

2yadushikanishije ukwizera muri ubu buntu duhagazemwo, kandi tunezerezwa no kwizigira kuzobona ubwiza bw' Imana.

3Kandi si vyo vyonyene, ariko kandi tunezererwe n'amarushwa yacu, kuko tuzi yuko amarushwa atera ukwihangana;

4kandi ukwihangana kugatera kudatsindwa no kugeragezwa; kudatsindwa no kugeragezwa kugatera kwizigira ibitaraba.

5Ukwo kwizigira ntigutetereza, kuko urukundo rw'Imana rwasutswe hose mu mitima yacu na Mpwemu Yera twahawe.

6Tugifise intege nke, mu gihe gikwiye Kristo yapfiriye abatubaha Imana.

© 2007 Bible Society of Burundi.

7Ko ari ibigoye k'umuntu apfira umugororotsi, umunyangeso nziza kumbure umuntu yotinyuka kumupfira.

8Ariko Imana yatweretse urukundo rwayo idukunda, kuko Kristo yadupfiriye tukiri abanyavyaha.

9Nuko none tumaze guhindurwa intungane n'amaraso yiwe, tuzorushiriza guheshwa na we gukizwa ishavu ry' Imana.

10Ko twujujwe n'Imana n'urupfu rw'Umwana wayo, tukiri abansi bayo, none tumaze kwuzura na yo, ubugingo bwiwe buzorushiriza kudukiza.

11Kandi si vyo vyonyene, ariko ikindi, tunezererwa Imana ku bwo Umwami wacu Yesu Kristo, yaduhesheje kwuzura na yo.

12None rero ko bimeze bityo, nk'uko icaha cazanywe mw'isi n'umuntu umwe, urupfu rukazanwa n'icaha, ni ko urupfu rushika ku bantu bose, kuko bose bakoze ivyaha.

13Ivyagezwe bitarabaho, icaha cari mw'isi, ariko abantu ntibaharurwako icaha, ivyagezwe bitariho.

14Ariko uhereye kuri Adamu, ukageza kuri Mose, urupfu rwaganza n'abatakoze icaha gisa n'igicumuro ca Adamu, yari igishushanyo c'uwagira azoze.

15Ariko ingabire y'Imana ntimera nka ca gicumuro. Ko igicumuro c'umwe catumye abenshi bapfa, ubuntu bw'Imana n'ingabire y'ubuntu bw'umuntu umwe Yesu Kristo vyarushirije gusaguka kuri benshi.

16Kandi iyo ngabire ntiyaje nk'icazanywe n'igicumuro c'umuntu umwe; kuko gucirwa urubanza kwavuye ku muntu umwe, kugatera gutsindwa, ariko ya ngabire yavuye mu bicumuro vyinshi, izana guhindurwa intungane.

17Ko igicumuro c'umwe catumye urupfu rushirwa ku butware n'umwe, abakira ubuntu n'ingabire yo kugororoka bisesekaye bazorushiriza gushirwa ku butware mu bugingo n'umwe, Yesu Kristo.

18None rero nk'uko gucirwa urubanza kwazanywe n'igicumuro kimwe ku bantu bose, ngo batsindwe, ni ko ya ngabire yazanywe n'igikorwa kigororotse kimwe ku bantu bose, ngo bahindurwe abera baronke ubugingo.

19Kandi nk'uko kutumvira Imana kw'umuntu umwe kwatumye benshi bacika abanyavyaha, ni ko kuwumvira kw'umwe kuzotuma benshi bacika abagororotsi.

20Ariko ivyagezwe vyaje na vyo, kugira ngo gucumura kugwire. Yamara, aho icaha cagwiriye ni ho ubuntu bw' Imana bwarushirije kugwira,

21kugira ngo, nk'uko icaha cashizwe ku butware n'urupfu, mube ari ko n'ubuntu bw'Imana bushirwa ku butware n'ukugororoka, buheshe ubugingo budashira, kubwa Yesu Kristo Umwami wacu.

## Abaroma 6

© 2007 Bible Society of Burundi.

1 Nuko tuvuge iki? Mbega twame dukora ivyaha kugira ngo ubuntu bw'Imana bugwire?

2 Biragahera. Twebwe twapfuye ku caha, twoba tukikibamwo dute?

3 Canke ntimuzi yuko twese ababatirijwe kuba muri Kristo Yesu, twabatirijwe kuba mu rupfu rwiwe?

4 None rero kubatizwa kwatumye duhambanwa na we tuba mu rupfu rwiwe, kugira ngo, nk'uko Kristo yazuwe mu bapfuye n'ubwiza bwa Data wa twese, kube ari ko natwe tugendana ubugingo busha.

5 Ko twakoranijwe na we n'igishushanyo c'urupfu rwiwe, tuzokoranywa na we n'ico ukuzuka kwiwe na co.

6 Kandi tumenye iki, yuko umuntu wacu wa kera yabambanywe na we, kugira ngo umubiri w'icaha uhindurwe ubusa, ntitwame tujakariye icaha:

7 kuko uwapfuye aba atsindanishirijwe icaha.

8 Ariko bisanzwe twapfanye na Kristo, twizera yuko tuzobanaho na we;

9 kuko tuzi yuko Kristo, amaze kuzuka mu bapfuye, atagipfa, urupfu rutakimuganza.

10 Ukwo gupfa yapfuye, ni ho yapfuye rimwe ku caha; ariko ko ariho, ariho ari uwo Imana.

11 Mube ari ko namwe mwiyumvira ko mwapfuye ku caha, ariko ko muriho muri abo Imana, muri muri Kristo Yesu.

12 None rero icaha ntikikabe ku butware mu mibiri yanyu izopfa, ngo mwumvire ivyo yifuza.

13 Kandi ntimugahe icaha imibiri yanyu ngo ikoreshwe n'ukugabitanya; ariko mwishikanire Imana nk'abazuke bavuye mu bapfuye, n'imibiri yanyu muyihe Imana kugira ngo ikoreshwe no kugororoka.

14 Icaha ntikizobaganza, kuko mutaganzwa n'ivyagezwe, ariko muganzwa n'ubuntu.

15 Nuko tugire dute? Mbega dukore ivyaha, kuko tutaganzwa n'ivyagezwe, ariko tuganzwa n'ubuntu? Biragahera.

16 Ntimuzi yuko shobuja mwihaye kuba abakozi bo kumwumvira, muri abakozi b'uwo mwumvira uwo? Namba muri abakozi b'icaha kizana urupfu, canke abo kwumvira Imana kuzana ukugororoka.

17 Ariko, Imana ishimwe yuko naho mwari abakozi b'icaha, mwumviye mu mitima uburyo bwo kwigishwa mwahawe:

18 kandi mwacunguwe ngo ntimuganzwe n'icaha, mujakarira ukugororoka.

19 Ndabivuze nk'imvugo y'abantu, ku bwo intege nke z'imibiri yanyu. Nk'uko mwaha imibiri yanyu ibiteye isoni n'umugararizo, kuba abakozi bavyo, bigatuma muba

© 2007 Bible Society of Burundi.

abagarariji, abe ari ko na none muha ukugororoka imibiri yanyu, kuba abakozi bakwo, kugira ngo mwezwe.

20Mukiri abakozi b'icaha, ntimwaganzwa n'ukugororoka.

21None rero ico gihe mwari n'imbuto ki mu bibamaramaza ubu? kuko amaherezo yavyo ari urupfu.

22Ariko noneho, ko mwacunguwe ngo ntimuganzwe n'icaha, mukajakarira Imana, mufise imbuto zanyu zizana ukwezwa, kandi amaherezo ni ubugingo budashira.

23Ingero y'icaha n'urupfu ariko ingabire y'Imana ni ubugingo budashira, bubonerwa muri Kristo Yesu Umwami wacu.

## Abaroma 7

1Canke ga bavukanyi, ntimuzi yuko ivyagezwe biganza umuntu akiriho? mbwiye abazi ivyagezwe.

2Kuko ivyagezwe bihambirira umugore ku mugabo wiwe, akiriho; ariko umugabo wiwe iyo apfuye, umugore aba abohowe ngo ntaganzwe na we.

3None rero, umugabo wiwe akiriho, yokurongorwa n'uwundi mugabo, yokwitwa umusambanyikazi: ariko umugabo wiwe iyo apfuye, ntaba akiganzwa n'ivyagezwe, bituma atoba umusambanyikazi, naho yokurongorwa n'uwundi mugabo. “

4None rero namwe, bavukanyi banje, gukoranywa n'umubiri wa Kristo kwatumye mucika abapfuye ku vyagezwe, kugira ngo mube abo uwundi, ni we yazutse mu bapfuye, twamire Imana imbuto.

5Tukiganzwa n'akameremere kacu, ukwifuza kw'ivyaha kw'uburyo bwinshi kwazanywe n'ivyagezwe kwakorera mu mibiri yacu, kugira ngo twamire urupfu imbuto.

6Ariko noneho ntitukiganzwa n'ivyagezwe, kuko twapfuye ku camye kidufashe, ni co gituma tuba abakozi, dukorera Mpwemu adukoresha uburyo busha, tudakoreshwa bwa buryo bwa kera bw'inyuguti.

7Nuko tuvuge iki? Mbega ivyagezwe ni icaha? Eka na mba. Ariko simba naramenye icaha, iyo ntakimenyeshwa n'ivyagezwe; kuko ntaba naramenye ukwifuza, iyo ivyagezwe bitavuga " ngo Ntukifuze.

8Ariko, icaha kibonye urwitwazo mu vyagezwe, kinkoreramwo ukwifuza kw'uburyo bwose; kuko icaha kiba gipfuye, ivyagezwe bitariho.

9Nanje kera nariho, ntafise ivyagezwe. Maze icagezwe kije, icaha kirarabuka, nanje ndapfa;

10kandi ico cagezwe co kuzana ubugingo nakibona kinzanira urupfu.

11Kuko icaha campendahenze, kibonye urwitwazo mu cagezwe, kandi kigitera kunyica.

© 2007 Bible Society of Burundi.

12None rero ivyagezwe ni ivyera, kandi ibwirizwa ni iryera, rigororotse, ryiza.

13Mbega iciza cambereye urupfu? Eka na mba! ariko icaha ni co carubaye, ngo kimenyekane ko ari icaha, kuko canyicishije iciza, ngo icagezwe gitume icaha kirushiriza kuba kibi.

14Kuko tuzi yuko ivyagezwe ari ivyo impwemu; ariko jewe nganzwa n'akameremere kanje, naguriwe kuba umushumba w'icaha.

15Sinzi ico nkora; kuko ico ngomba atari co nkora, ariko ico nanka akaba ari co nkora.

16Ariko ko nkora ico ntagomba, mba nemeye ivyagezwe ko ari vyiza.

17None rero si jewe nkibikora, ariko ni icaha kimbamwo.

18Ndazi yuko muri jewe, mu kameremere kanje, ata ciza kimbamwo; kuko kugomba gukora iciza kubana nanje, ariko kugikora nta kwo;

19kuko iciza ngomba atari co nkora, ariko ikibi ntagomba akaba ari co nkora.

20Ariko ko nkora ico ntagomba, si jewe nkigikora, ariko ni icaha kimbamwo.

21Ni ko mbona ikingera, yuko naho ngomba gukora iciza, ikibi kibana nanje.

22Nezererwa ivyagezwe n'Imana mu mutima wanje,

23ariko mbona ikindi kingera kiri mu mubiri wanje kirwanya ikingera co mu mutima wanje, kikamfatira mpiri kuganzwa n'ikingera kiri mu mubiri wanje, ikingera c'icaha.

24Ewe jewe ndagowe! Ni nde yonkiza umubiri untera uru rupfu?

25Imana ishimwe, kubwa Yesu Kristo Umwami wacu. Nuko jewe mu mutima wanje njakariye ivyagezwe n'Imana, ariko mu kameremere njakariye ikingera c'icaha.

## Abaroma 8

1Nuko rero noneho abari muri Kristo Yesu nta rubanza ruzobatsinda.

2kuko ikingera ca Mpwemu w'ubugingo bwo muri Kristo Yesu cancunguye ngo singanzwe n'icangera c'icaha n'ico urupfu.

3Ico ivyagezwe bitashoboye gukora kuko bifise intege nke ku bwo akameremere kacu, Imana yatumye Umwana wayo, afise ishusho y'umubiri w'icaha, kuba ikimazi c'icaha, itsindisha icaha kiri mu mubiri,

4kugira ngo ivyo ivyagezwe bibwiriza bishikanwe muri twebwe, tutagenda mu buryo bw' akameremere kacu, ariko tugenda mu bwa Mpwemu w' Imana;

5kuko abaganzwa n'akameremere k'umubiri bitwaririka ivyo umubiri, kandi abaganzwa n'impwemu bitwaririka ivyo impwemu.

6Kwitwaririka ivyo umubiri kuzana urupfu, ariko kwitwaririka ivyo impwemu kuzana ubugingo n'amahoro.

© 2007 Bible Society of Burundi.

7 Kuko kwitwaririka ivyo umubiri gutera kwanka Imana, kuko kutumvira ivyagezwe n'Imana, kandi kudashobora kuvyumvira;

8 Kandi abaganzwa n'akameremere k'umubiri ntibashobora guhimbara Imana.

9 Ariko mweho ntimuganzwa n'akameremere k'umubiri, ariko muganzwa n'impwemu, bisanzwe Mpwemu w'Imana mubana. ariko iyo umuntu adafise Mpwemu wa Kristo ntaba ari uwiwe.

10 Bisanzwe Kristo ari muri mwebwe, umubiri uba upfuye ku bwo icaha, ariko impwemu ni nzima ku bwo kugororoka.

11 Ariko bisanzwe Mpwemu w' Iyazuye Yesu imukuye mu bapfuye mubana, Iyazuye Kristo Yesu imukuye mu bapfuye izozura n'imibiri yanyu ipfa, kubwa Mpwemu wayo mubana.

12 None rero, bavukanyi, turi n'umwenda, atari uwo akameremere kacu, ngo twitondere ivyako.

13 Kuko namba mwitondera ivyo akameremere kanyu, ntimuzobura gupfa; ariko ni mwica ivyo umubiri ukora, muvyicisha impwemu, muzobaho.

14 Abarongorwa na Mpwemu w'Imana bose ni bo bana b'Imana.

15 Kuko mutahawe impwemu y'ubuja ngo mwongere gutinya; ariko mwahawe impwemu yo kubahindura abana b'Imana, ni yo ituma dutakamba tuti: "Abba"

16 Mpwemu ubwiwe abwiririkanya n'impwemu yacu, ari icabona, yuko turi abana b'Imana.

17 Ariko ko turi abana bayo, turi abaragwa; turi abaragwa b'Imana, turi abaraganwa na Kristo, namba tubabazanywa na we, ngo tubone guhanwa ubwiza na we.

18 Niyumvira yuko imibabaro y'iki gihe idakwiye kugereranywa n'ubwiza tuzohishurirwa.

19 Kuko ivyaremwe vyiteze uguhishurwa kw'abana b'Imana biguhahamiye cane.

20 Kuko ivyaremwe vyagezwe kuganzwa n'ibitagira ikimazi, kandi si vyo vyavyigombeye, ariko vyagizwe n'Iyageze ko biganzwa bityo,

21 kugira ngo vyizigire yuko na vyo bizocungurwa ngo ntibibe ibihumbwa vyo kubora, bizohabwa ukwidegemvya, gufatana n'ubwiza bw'abana b' Imana.

22 Kuko tuzi yuko ivyaremwe vyose binihira hamwe bikaramukirwa hamwe kugeza n'ubu.

23 Kandi si co gusa, ariko natwe abafise ku vyeze ubwa mbere vya Mpwemu, natwe nyene tunihira mu mitima yacu, twiteze gucika abana b'Imana, ni kwo gucungurwa kw'imibiri yacu.

24 Kuko twakijijwe mu buryo bwo kugira ico twiteze; ariko icari citezwe iyo kibonetse ntikiba kicitegwa. Ico umuntu abonye, yoba akicitega ate?

© 2007 Bible Society of Burundi.

[25]Yamara ko twiteze ico tutarabona, nuko tukirorera twihangana.

[26]Ni ko na Mpwemu adufasha mu ntege nke zacu; kuko tutazi uko dukwiye gusenga, ariko Mpwemu ubwiwe aradusengera, aniha iminiho itovugwa;

[27]ariko Iyisesa imitima irazi ivyo Mpwemu yiyumvira, kuko uko Imana igomba ari ko Mpwemu asengera abera.

[28]Kandi turazi yuko ku bakunda Imana vyose bifataniriza hamwe kubazanira ivyiza, abahamagawe nk'uko yabigabiye.

[29]Kuko abo yamenye kera yabatoranirije kera gushushanywa n'ishusho y'Umwana wayo, kugira ngo abe imfura mu bana ba Se benshi.

[30]Abo yatoranije kera, yarabahamagaye; abo yahamagaye, yabagize abera; abo yagize abera, yabahaye ubwiza.

[31]Ko bimeze bityo, tuvuge iki? Bisanzwe Imana iri mu ruhande rwacu, uwoturwanya ni nde?

[32]Iyitimanye Umwana wayo, ikamutanga kubwacu twese, izobura ite kutugabirira vyose kuri we?

[33]Ni nde azorega abo Imana yatoranije? Mbega ni Imana, kandi ari yo ibahindura intungane?

[34]Ni nde azobagira abera? Mbega ni Kristo Yesu, kandi ari we yapfuye? Ibibiruta yarazutse, ari i buryo bw'Imana, bitayeko aradusengera.

[35]Ni nde azodutandukanya n'urukundo rwa Kristo? Mbega ni amarushwa, ni ivyago, ni uguhamwa, ni inzara, ni ukwambara ubusa, ni ukuba mw'irinde, canke ni inkota?

[36]Nk'uko handitswe, ngo Twiririrwa twicwa, bakuduhora, Twagereranijwe n'intama z'imbagwa.

[37]Ariko muri ivyo vyose turushaho gutsindirwa n'uwadukunze.

[38]Kuko menye neza ntabikekeranya yuko naho rwoba urupfu, ubugingo, abamarayika, abaganza, ibiriho, ibizoba, abafise ubushobozi,

[39]uburebure bw' amaja ruguru, uburebure bw' amajepfo canke ikindi caremwe cose, ata kizoshobora kudutandukanya n'urukundo rw'Imana ruri muri Kristo Yesu Umwami wacu.

## Abaroma 9

[1]Ndavuga ukuri muri Kristo, simbesha, ijwi ryo mu mutima wanje rirabinyemeza muri Mpwemu Yera,

[2]yuko mfise intuntu nyinshi n'umubabaro udahengeshanya mu mutima.

[3]Iyaba vyashoboka, noshimye kuvumwa no kuba igicibwa kuri Kristo kubwa bene wacu, abo tuvukana ku mubiri,

© 2007 Bible Society of Burundi.

4ni bo Bisirayeli, ivyabo ni uguhinduka abana b'Imana, ubwiza, amasezerano, guhabwa ivyagezwe, gusenga Imana n'ivyasezeranywe;

5bafise ba sogokuruza ba bandi, kandi ku mubiri Kristo yamutse kuri bo, ni we ari hejuru ya vyose, ni we Mana ikwiye gushimwa ibihe bidashira. Amina.

6Ariko si ukugira ngo ijambo ry'Imana ntiryashitse; kuko abamutse kuri Isirayeli atari bo Bisirayeli bose.

7Kandi kuko ari uruvyaro rwa Aburahamu, si co kibagira abana biwe bose; ariko, kuri Isaka ni ho uruvyaro rwawe ruzokwitirirwa.

8Ni kwo kuvuga ko abana b'umubiri atari bo bana b'Imana, ariko abana b'isezerano ni bo baharurwa nk'uruvyaro.

9Kuko ijambo ry'isezerano ari iri, ngo ikindi gihe nk'iki nzoza, Sara yavyaye umuhungu.

10Kandi si co gusa, ariko na Rebeka, igihe yari amaze gusama inda y'umugabo umwe, Isaka sogokuruza,

11kandi abana bataravuka, batarakora iciza canke ikibi, ngo ivyo Imana yagabiye itoranya bibeho, bitavuye ku vy'abantu bakora, ariko vyavuye ku Iyibahamagara,

12ico gihe yabwiwe, ngo Bukuru azoshumbira Butoyi;

13nk'uko handitswe, ngo Yakobo naramukunze, Esawu na we naramwanse.

14Nuko tuvuge iki? Mbega Imana irarenganya? Eka na mba!

15Kuko yabwiye Mose iti: "Nzogirira ikigongwe uwo nshatse kuzigirira, ngirire n'imbabazi uwo nshatse kuzigirira.

16Ni co gituma bitava ku kugomba kw'umuntu, canke ku gushimika kwiwe, ariko biva ku Mana igira ikigongwe.

17Kuko ivyanditswe vyabwiye Farawo, ngo icatumye ndaguhagarika ni ukugira ngo ndakwerekanireko ubushobozi bwanje, kandi ngo izina ryanje rivugwe hose mw'isi yose.

18Nuko igirira ikigongwe uwo igomba, kandi ikomantaza umutima w'uwo igomba.

19Nuko wombaza uti: "Ni igiki gituma ikigaya umuntu? Ni nde yankiye ivyo igomba?

20Ariko ga wa muntu, uri nde, uharira n' Imana? Mbega icabumbwe cobaza uwakibumvye kiti: 'Ni igiki catumye umbumba utya?’

21canke umubumvyi ntagera ibumba rimwe ngo aribumbemwo urwavya rumwe rwo gukoresha ivyo icubahiro, n'urundi rwo gukoresha ibiteye isoni?

22Mbega hari ico biriko, naho Imana yagomvye kwerekana ishavu ryayo, no kumenyesha ubushobozi bwayo, namba yihangananiye imbabazi nyinshi inzavya z'ukuraka, ziteguriwe guhona;

© 2007 Bible Society of Burundi.

23kugira ngo yerekanire ubutunzi bw'ubwiza bwayo ku nzavya z'ikigongwe, izo yiteguriye guha ubwiza kera,

24kuri twebwe, abo yahamagaye, si mu Bayuda bonyene ariko no mu banyamahanga?"

25Nk'uko yavugiye mu kanwa ka Hoseya iti: "Abatari abantu banje nzobita abantu banje, Kandi uwutari inkundwakazi nzomwita inkundwakazi.

26Kandi aho hantu babwiriwe, ngo ntimuri abantu banje, Ni ho bazokwitirwa abana b'Imana nzima."

27Kandi Yesaya asemerera ivyo Abisirayeli ati: "Igitigiri c'Abisirayeli n'iyo coba nk'umusenyi wo ku kiyaga, amasigarira ni yo azokira;

28kuko Uhoraho azoshitsa ijambo ryiwe mw'isi, ariringanize kandi arihimbure."

29Kandi nk'uko Yesaya yavuze kera ati: "Iyaba Uhoraho Nyeningabo atadusigarije uruvyaro, Tuba twarabaye nk'i Sodomu, tukagirwa nk'i Gomora."

30None tuvuge iki? Ehe tuvuge yuko abanyamahanga batakurikiye ivyo ukugororoka bashitse ku kugororoka, ni kwo kugororoka kuva ku kwizera.

31Ariko Abisirayeli bakurikiye ivyo ivyagezwe vy'ukugororoka, ntibabishikako.

32Ni ku ki? Ni uko batabirondereshej ukwizera, yamara babirondereshej ibikorwa nk'ivyobibahesha, batsitara kuri rya buye ritsitaza,

33nk'uko handitswe, ngo ehe ndashira i Siyoni ibuye ritsitaza, urutare rugwisha, Kandi uwizera uwo ntazoterwa n'isoni.

## Abaroma 10

1Bavukanyi, ivyohimbara umutima wanje n'ivyo nsengera Abisirayeli ku Mana, ni ukugira ngo bakizwe.

2Ndabashingira intahe yuko bafise ishaka ry'Imana, ariko si mu buryo bw'ubwenge;

3ko batari bazi ukugororoka kuva ku Mana bakarondera kwishingira ukugororoka kwabo ubwabo, ntibaganjwe n'ukuva ku Mana.

4Kuko Kristo ari we ivyagezwe bishikirako, kugira ngo aheshe uwizera wese ukugororoka.

5Mose yanditse ati: "Uwushishikara ukugororoka kuva ku vyagezwe ni kwo kuzomubeshaho."

6Ariko ukugororoka kuva ku kwizera kuvuga gutya, ngo ntiwibaze uti: "Ni nde azoduga, ngo aje mw'ijuru? (risobanurwa ngo kumanukana Kristo),"

7canke uti: "Ni nde azomanuka i kuzimu? (risobanurwa ngo kudugana Kristo, amukuye mu bapfuye)."

© 2007 Bible Society of Burundi.

8Ariko kwavuze gute? Kwavuze kuti: "Ijambo riri hafi yawe, riri mu kanwa kawe no mu mutima wawe; ni ryo jambo ryo kwizera, iryo tubigisha."

9Kuko ni waturisha akanwa yuko Yesu ari Umwami, ukizera mu mutima yuko Imana yamuzuye imukuye mu bapfuye, uzokizwa;

10kuko umutima ari wo umuntu yizeresha, akaronka ukugororoka; kandi akanwa akaba ari ko yaturisha, akaronka agakiza.

11Kuko ivyanditswe bivuga, ngo uwumwizera wese ntazoterwa n'isoni.

12Nta tandukaniro ry'Umuyuda n'Umugiriki; kuko Umwami umwe ari Umwami wa bose, ni we afise ubutunzi bukwiye abamwambaza bose;

13kuko, Umuntu wese azokwambaza izina ry'Uhoraho azokizwa.

14None bazokwambaza bate uwo batarizera? Kandi bazokwizera bate uwo batarumva? Kandi bazokwumva bate, ata wabasiguriye ivyiwe?

15Kandi bazosigura ivyiwe bate, batatumwe? Nk'uko handitswe, ngo ewe kuntu ibirenge vy'abazanye ubutumwa bw'ivyiza ari vyiza!

16ariko abumviye ubutumwa bwiza si bose. Kuko Yesaya yavuze ati: "Mwami, ni nde yemeye ivyo twumvise?"

17Nuko ukwemera kuva ku kwumva, n'ukwumva kuzanwa n'ijambo rya Kristo.

18Ariko ndabaza. Mbega ntibumvise? Ego, barumvise. Ijwi ryavyo ryumvikanye mw'isi yose, Bo n'amajambo yavyo ku mpera y'isi.

19Ariko ndabaza. Mbega Abisirayeli ntibababimenye? Mose ni we yabanje kuvuga ati: "Nzobateza ishari abatari ihanga ry'ukuri, Nzobarakisha ihanga ry'imburabwenge."

20Kandi Yesaya ashira amanga cane, aravuga ati: "Nabonywe n'abatandondeye, Neretswe abatambaririkije."

21Ariko ku Bisirayeli aravuga ati: "Niririwa ntegeye amaboko ubwoko butumva butongana."

## Abaroma 11

1Nuko ndabaza: Mbega Imana yaciye abantu bayo? Eka na mba! Kuko nanje ndi Umwisirayeli, wo mu ruvyaro rwa Aburahamu, wo mu muryango wa Benyamini.

2Imana ntiyataye abantu bayo yamenye kera. Canke ntimuzi uko ivyanditswe bivuga kuri Eliya? Ko yareze Abisirayeli ku Mana

3ati: "Mwami, bishe abavugishwa nawe, basambuye ibicaniro vyawe, nanje nsigaye jenyene, kandi barangenza ngo banyice."

4Ariko Imana yamwishuye ngo iki? Iti: " Nisigarije abantu ibihumbi indwi batapfukamiye Bayali."

© 2007 Bible Society of Burundi.

5Nuko ni ko biri no muri iki gihe, hariho amasigarira nk'uko yatoranijwe n'ubuntu bw'Imana.

6Ariko ni vyaba bivuye ku buntu, ntibikiva ku bikorwa; Namba atari ko biri, ubuntu si bwo buntu.

7None vyabaye bite se? ico Abisirayeli barondeye, ntibakibonye; ariko, abatoranijwe barakironse, abandi bakomantazwa imitima.

8Nk'uko handitswe, ngo Imana yabahaye umutima wo guhunyiza, n'amaso atabona, n'amatwi atumva, gushitsa kuri uwo musi.

9Kandi Dawidi yaravuze ati: "Imeza yabo ibe nk'ururiba, n'umutego, N'ikigwisha, n'inyishu yabo:

10Amaso yabo ni ahumwe, ntibabone, Kandi wame ubahetamitse umugongo imisi yose.”

11Nuko ndabaza: Mbega batsitariye kugwa mahera? Eka na mba! Yamara ukugwa kwabo kwazaniye abanyamahanga agakiza, ngo bitere Abisirayeli ishari.

12Ariko, k'ukugwa kwabo ari ubutunzi bw'abari mw'isi, n'ukugabanuka kwabo ari ubutunzi bw' abanyamahanga, ukugwira kwabo ntikuzorushiriza cane?

13Ariko ndababarira mwebwe, abanyamahanga. Ndashimisha igikorwa canje, kuko ndi intumwa ku banyamahanga,

14kugira ngo kumbure ntere ishari abo i wacu, nkize bamwe muri bo.

15Ko gutabwa kwabo kwazaniye abari mw'isi kwuzura n'Imana, ukugarukanwa kwabo kuzoba gute? Mbega ntikuzoba ubugingo buzutse mu bapfuye?

16Kandi ko ifu y'ivyeze ubwa mbere ari iyera, n'irobe ni ko rimeze; kandi ko igishitsi ari icera, n'amashami ni ko ameze.

17Ariko namba amashami amwe yarahanyuwe, nawe uri igihumbwa ca elayo watewe nk'ingurukizi hagati mu mashami, usangira na yo ubukame bw'igishitsi ca elayo bwite,

18ntiwihayagize kuri ayo mashami. Namba uyihayagizako si igishitsi kimeze kuri wewe, ariko ni wewe umeze ku gishitsi.

19Wovuga rero uti: "Amashami yahanyuwe kugira ngo nterweko.”

20Ni ko; ukutizera ni kwo kwayahanyuje, nawe ukwizera ni kwo kuguhagaritse. Ntiwibone, ariko wiyubare.

21Kuko Imana, ko itagiriye ikigongwe amashami bwite, nawe ntizokikugirira.

22Raba rero ukugira neza kw'Imana, n'ubuhambazi bwayo; ku baguye ni ubuhambazi, ariko kuri wewe ni ukugira neza kw'Imana, ni waguma muri ukwo kugira neza kwayo; kuko ni yo utagira utyo, nawe uzohanyurwa.

© 2007 Bible Society of Burundi.

23Kandi ba bandi na bo, ni bataguma mu kutizera, bazosubizwako nk'ingurukizi. Imana ishobora kubasubizako.

24Kuko, ko wahanyuwe ku giti cameze ari igihumbwa ca elayo, ugaterwa nk'ingurukizi muri elayo nziza, mudasangiye ubwoko, ba bandi babusangiye ntibazorushiriza cane guterwa muri elayo yabo?

25Bavukanyi, singomba ko mutamenya iri banga, ntimwiyite abanyabwenge, n'irya uko habaye gukomantaza imitima y'Abisirayeli, ariko si bose, gushitsa aho igitigiri gikwiye c'abanyamahanga kizokwinjirira mw'ishengero.

26Ni vyaba bityo, Abisirayeli bose bazokizwa, nk'uko handitswe, ngo i Siyoni hazova Umurokozi, Azokura muri Yakobo ukutubaha Imana;

27Kandi ni ryo sezerano, nsezeranye na bo, Aho nzobakurako ivyaha.

28Ku vy'ubutumwa bwiza, n'abansi kubwanyu: ariko ku vy'ugutoranya kw'Imana, n'abakundwa kubwa ba sekuruza.

29kuko ingabire z'Imana no guhamagara kwayo itavyicuza.

30Nk'uko mwebwe kera mwagarariza Imana, ariko none umugararizo wabo wazaniye mwebwe kugirirwa imbabazi:

31ni ko na bo none bagararije, kugira ngo imbabazi mwagiriwe zibazanire na bo kuzigirirwa.

32kuko Imana yugaraniye abantu bose mu mugararizo, kugira ngo ibagirire imbabazi bose.

33Yo, uburebure bw'amajepfo bw'ubutunzi bw'ubwenge no kumenya vy'Imana! Imigabo yayo ntishoboka kubariritswa, n'inzira zayo ntizigira akehe!

34Ni nde yamenye umutima w'Uhoraho? Canke ni nde yabaye umuhanuzi wiwe?

35Canke ni nde yabanje kumuha kandi akazokwishurwa?

36Kuko vyose biva muri we, kandi bizanwa na we, kandi vyamuremewe: icubahiro kibe iciwe ibihe bidashira. Amina.

## Abaroma 12

1Nuko bavukanyi, ndabahanura ku bwo imbabazi z' Imana, ngo Muzotange imibiri yanyu ibe ibimazi bizima vyera, bihimbara Imana, ni kwo kuyikorera kwanyu kwogira ikimazi.

2Ntimushushanywe n'ivyo iki gihe, yamara muhinduke rwose, mugize imitima mishasha, kugira ngo mumenye neza ivyo Imana igomba, ni vyo vyiza bishimwa, bitunganye rwose.

3Ndabwira mbwirijwe n'ubuntu nahawe, umuntu wese muri mwebwe, areke kwifata uko atari, yamara yiyumvire yitonze nk'uko Imana yagereye umuntu wese ukwizera.

© 2007 Bible Society of Burundi.

4Nk'uko mu mubiri umwe dufise ingingo nyinshi, kandi ingingo zose zitagira igikorwa kimwe,

5natwe ni ko turi. Turi benshi, kandi turi umubiri umwe muri Kristo, umuntu wese ni urugingo rw'uwundi.

6Nuko dufise ingabire zitandukana, nk'uko ubuntu twahawe butandukana namba twarahawe kuvugishwa n'Imana, tuvugishwe na yo uko ukwizera kwacu kungana;

7canke namba twarahawe igikorwa co mw'ishengero, tugishishikare; canke uwigisha ashishikarire kwigisha;

8canke uhanura ashishikarire guhanura; ugira ubuntu, abugire ata kinubwe; uganza aganzanye umwete; ugira imbabazi, azigire anezerewe.

9Urukundo rwanyu ntirube uruheyiheyi. Mwanke ibibi, mumatane n'ivyiza.

10Ku vyo gukunda bavukanyi, mukundane rwose. Ku vy'icubahiro, umuntu wese ashire imbere mugenzi we;

11ku vy'ugushishikara, ntimugire urwangara; mukovye mu mitima gukorera Umwami wacu.

12Munezererwe kwizigira ibizoba; mwihanganire amagorwa; mushishikare gusenga.

13Mugabanirize abera, uko bakenye; mushishikare gutanga indaro.

14Ababahama mubahezagire; mubahezagire, ntimubavume.

15Munezeranwe n'abanezerewe, murirane n'abarira.

16Muhuze umutima; ntimushire umutima ku bikomeye, ariko mugendane n'ivyiyoroheje. Ntimwiyite abanyabwenge.

17Ntimusubirize umuntu mu nkoko ikibi yabagiriye; mubabare gukora ivyiza imbere y'abantu bose.

18Namba bishoboka, mu ruhande rwanyu, mwuzure n'abantu bose.

19Abo nkunda, ntimwihorane, ariko muhe uburyo ishavu ry'Imana; kuko handitswe, ngo Uguhora n'ukwanje, ni jewe nzobasubiriza mu nkoko, ni ko Uhoraho avuze.

20Ariko, Umwansi wawe ni yasonza, umugaburire; ni yagira inyota, umuhe ico anywa; kuko ni wagira utyo, uzoba umurunzeko amakara yaka ku mutwe.

21Ikibi ntikikuneshe, yamara ikibi ukinesheshe iciza.

## Abaroma 13

1Umuntu wese n'agamburukire abamuganza; kuko ata kuganza kutava ku Mana, ukuriho kwagezwe n'Imana.

2Ni co gituma, uwugabagabiye uwuganza aba agabagabiye icagezwe n'Imana. Kandi abakigabagabiye bazoba bihamagariye gutsindwa n'urubanza.

© 2007 Bible Society of Burundi.

3Kuko abaganza atari abateye ubwoba k'uwukora iciza, kiretse uwukora ikibi. Uragomba kutagirira ubwoba uwuganza? Kora neza, azogushima.

4Kuko ari umukozi w'Imana ku bwawe, ngo akuzanire ivyiza. Ariko ni wakora nabi, ugire ubwoba, kuko atambarira inkota ubusa, kuko ari umukozi w'Imana, umuhozi ashitsa ishavu k'uwukora nabi.

5Ni co gituma ukwiye kugamburuka, atari ku bwo kurakirwa gusa, ariko no kubwo ijwi ryo mu mutima.

6Ni co gituma kandi mutanga ikori; kuko abaganza ari abakozi b' Imana, bashishikarira ico gikorwa nyene.

7Muhe bose ivyo bakwiye; abahabwa ikori mubahe ikori; ababuguza mubabugurire; abo gutinywa mubatinye; abo kwubahwa mububahe.

8Ntihagire uwo mugirira umwenda, atari ugukundana; kuko ukunda uwundi aba ashikije ivyagezwe.

9Kuko ibi, ngo ntugasambane, ntukice, ntukibe, ntukifuze, n'ikindi cagezwe cose, bipoperanirijwe muri iri jambo, ngo Ukunde umubanyi nk'uko wikunda.

10Ufise urukundo ntagirira umubanyi we nabi. Ni co gituma urukundo ari rwo rushitsa ivyagezwe.

11Nuko mwame mugenza mutyo, kuko muzi imisi, yuko igihe gishitse co kwikangura. Noneho agakiza kacu karatwegereye, kurusha igihe twizereye.

12Ijoro rirakuze, bugira buce. Nuko twiyambure ibikorwa vy'umwiza, twambare ibirwanisho vy'umuco.

13Tugendane ingeso nziza, nk' abagenda ku murango, tutadandahirwa, tutaborerwa, tudasambana, tudakora ivyo isoni nke, tudatongana, tutagira ishari.

14Ariko mwambare Umwami Yesu Kristo, kandi ntimubabare ivyo umubiri, ngo mukore ivyo wifuza.

## Abaroma 14

1Uwudakomeye mu vyizerwa, mumwemere, ariko si ukumuhaririza ku vy' akekeranya.

2Umuntu umwe afise ukwizera kwo kumurisha vyose, ariko udakomeye arya ibirimwa gusa.

3Uwurya inyama ntakengere uwutazirya; kandi uwutazirya ntahinyure uwuzirya, kuko Imana yamwemeye.

4Wewe uri nde uhinyura umushumba w'abandi? Kuko imbere ya shebuja ari ho ahagarara canke agatemba; mbere ushime azohagarara, kuko Umwami wacu ashobora kumuhagarika.

© 2007 Bible Society of Burundi.

5 Umuntu umwe ashima umusi umwe kuwurutisha iyindi; uwundi agashima imisi yose. Umuntu wese ni ashirwe mu mutima wiwe.

6 Uwiyumvira umusi awiyumvira kubwo Umwami wacu; uwurya inyama azirya kubwo Umwami, kuko ashima Imana; kandi uwutazirya, yanka kuzirya kubwo Umwami, na we ashima Imana.

7 Kuko ata muntu muri twebwe ariho kubwiwe, canke apfa kubwiwe.

8 Namba turiho, turiho kuba abo Umwami; kandi namba dupfa, dupfira kuba abo Umwami. Nuko namba turiho, canke namba dupfa, turi abo Umwami.

9 Kuko icatumye Kristo apfa, akazuka, ari ukugira ngo abe Umwami w'abapfuye kandi n'uwo abariho.

10 Ariko weho, ni igiki gituma uhinyura umwana wa So? Kandi nawe, ni igiki gituma ukengera umwana wa So? Kuko twese tuzohagarara imbere y'intebe y'imanza y'Imana.

11 Kuko handitswe, ngo nk'uko ndiho, ni ko Uhoraho avuze, amavi yose azompfukamira, N'indimi zose zizovuga ishimwe ry'Imana.

12 Nuko rero, umuntu wese muri twebwe azobazwa n'Imana ivyo yakoze.

13 Uhereye ubu rero, ntiduhinyurane; yamara tugire iyi migabo; ngo ntihagire uwushira igitsitaza canke ikigwisha imbere y'umuvukanyi.

14 Ndabizi, kandi nemejwe neza n'Umwami Yesu, yuko ata gihumanya ubwaco; kiretse uwiyumvira ko ikintu gihumanya, ni we cohumanya.

15 Iyo umwana wa So ababajwe n'ivyo urya, ntuba ukigendera mu rukundo. Uwo Kristo yapfiriye ntumuranduze ivyo kurya vyawe.

16 Iciza canyu ntigitukwe.

17 Kuko ubwami bw'Imana atari ukurya n'ukunywa, ariko ni ukugororoka, amahoro n'umunezero vyo muri Mpwemu Yera.

18 Uwukorera Kristo atyo, ahimbara Imana, kandi n'abantu baramwemera.

19 Nuko dukurikire ivyo amahoro n'ivyo gukomezanya.

20 Ntimusenyure igikorwa c'Imana kubwo ivyo kurya. Vyose ntibihumanya koko, ariko, uwo muntu arya ibimutsitaza, azobona ibara.

21 Ni ciza kutarya inyama, canke kutanywa umuvinyu, canke kudakora ikindi cose gitsitaza umwana wa So, canke kimugwisha, canke kimutera intege nke.

22 Ukwizera ufise, ukugumane mu mutima wawe imbere y'Imana. Harahiriwe uwutihinyura ku vyo yemeye.

23 Ariko, uwukekeranya wese iyo ariye aba atsinzwe, kuko bitaba bivuye ku kwizera; ikitava ku kwizera cose ni icaha.

© 2007 Bible Society of Burundi.

# Abaroma 15

1Twebwe abakomeye dukwiye kwihanganira intege nke z' abadakomeye, no kutinezereza.

2Umuntu wese muri twebwe anezereze umuvukanyi wiwe, kugira ngo abone ivyiza, akomezwe.

3Kuko na Kristo atinejereje, nk'uko handitswe, ngo ibitutsi vy'abagutuka vyaguye kuri jewe. “

4Kuko ivyanditswe kera vyose vyandikiwe kutwigisha, kugira ngo kwihangana no guhumurizwa guheshwa n'ivyanditswe biduhe kwizigira ibizoba.

5Ariko Imana itanga ukwihangana n'uguhumurizwa ibahe guhuza imitima yanyu, nk'uko Kristo Yesu agomba,

6kugira ngo muhimbaze n'umutima umwe n'akanwa kamwe Imana y'Umwami wacu Yesu Kristo, ni yo Se.

7Nuko mwemerane, nk'uko Kristo na we yabemeye, kugira ngo Imana ishimishwe.

8Ico mvuga ni uko Kristo yacitse umukozi w'abahimbuwe igikoba c'ubugabo wo kubagaburira ivyo Imana, ku bwo ukuri kwayo, kugira ngo ashike ivyo ba sogokuruza basezeraniwe,

9kandi ngo abanyamahanga bahimbarize Imana imbabazi zayo, nk'uko handitswe hati:" "Ni co gituma nzogutazira mu mahanga, Ndirimbe izina ryawe.”

10Kandi yongera kuvuga ati: "Yemwe banyamahanga ni munezeranwe n'abantu bayo.”

11kandi arongera ati: "Yemwe banyamahanga mwese, ni mushime Uhoraho, kandi amoko yose amuhimbaze.”

12Kandi Yesaya na we yaravuze ati: "Hazobaho igishitsi ca Isayi, Ni we azohaguruka kuganza amahanga, Ni we abanyamahanga bazokwizigira.”

13Imana itanga ivyizigiro ibuzuze umunezero wose n'amahoro biva ku kwizera, kugira ngo murushirize kwizigira ibizoba, mubihawe n'ubushobozi bwa Mpwemu Yera.

14Bavukanyi, nanje nyene ndazi ivyanyu ntakekeranya, yuko mwuzuye ineza, mwuzuye ubwenge bwose, mushobora no guhanurana.

15Ariko ndabandikiye hamwe-hamwe ndushirije gushira amanga, nk'ubibutsa, kubwo ubuntu nahawe n'Imana,

16ngo mbe umukozi akora mu gikoni wa Kristo Yesu ku banyamahanga, ntegure ivyo ubutumwa bwiza bw'Imana nk'umuherezi, kugira ngo abanyamahanga babe ishikanwa rishimwa, ryejejwe na Mpwemu Yera.

17Nuko mfise ukwirata mu vy'Imana muri Kristo Yesu.

© 2007 Bible Society of Burundi.

18Sinzotinyuka kuvuga ikintu na kimwe atari ico nakoreshejwe na Kristo, kugira ngo
abanyamahanga bagamburuke, ampaye amajambo n'ibikorwa,

19n'ubushobozi bw'ibimenyetso bikomeye, n'ibitangaza, n'ubushobozi bwa Mpwemu
Yera. Ivyo vyatumye nshitsa ubutumwa bwa Kristo, utanguriye i Yerusalemu,
ugakikuza, ugashika no muri Iluriko.

20Namanye imigabo yo kuvuga ubutumwa bwiza, aho izina rya Kristo
ritaribwamenyekane, ngo sinubake kw'umushinge wubatswe n'uwundi;

21yamara ngo bimere nk'uko handitswe, ngo abatiganiwe ivyiwe bazobibona, Kandi
abataravyumva bazovyitegereza.

22Ni co gituma ngira igisivya kenshi co kuza i wanyu.

23Ariko noneho ntihakinyagukiye muri ibi bihugu, kandi uhereye mu myaka myinshi
nifuza kuza i wanyu,

24aho nzogira i Sipaniya. Kuko nizigira kuzobaraba nciye iyo, mukamperekeza,
mukansezera neza njayo, ni namara kugabanya inkumbu ndabafitiye.

25Ariko ubu ndiko ndaja i Yerusalemu kugaburira abera.

26Kuko abo i Makedoniya no muri Akaya bahimbawe no gusororanya ivyo gutabara
aboro bo mu bera b'i Yerusalemu.

27Vyarabahimbaye, kandi babafitiye umwenda: kuko namba abanyamahanga
basangiye ivyo impwemu vyabo, bafise umwenda wo kubafasha ku vy'umubiri.

28Ni naheraheza ivyo, maze kubashikiriza neza izo mbuto z'ubuntu, nzovayo, nce i
wanyu, nje i Sipaniya.

29Kandi ndazi yuko aho nzozira i wanyu, nzoza nzanye umugisha wa Kristo wuzuye.

30Nuko ndabinginga, bavukanyi, kubwo Umwami wacu Yesu Kristo, no kubwo
urukundo ruva kuri Mpwemu, murwanane nanje munsabire Imana,

31nkire abo i Yudaya batayumvira, kandi ingaburo yanje ngiye kugabura i
Yerusalemu ishimwe n'abera;

32mbone uko nza i wanyu nezerewe, Imana ni yabikunda, nduhukane namwe.

33Imana nyene amahoro ibane namwe mwese. Amina.

## Abaroma 16

1Ndabashimiye Foyibe muvukanyi, ni we mukozi w'ishengero ry'i Kenkireya,

2ngo mumwakire ku bwo Umwami wacu, nk'uko bibereye abera, kandi mumufashe ku
c'azogomba cose, kuko na we yafashije benshi, barimwo nanje.

3Muntahirize Purisikila na Akwila abakoranye nanje muri Kristo Yesu,

© 2007 Bible Society of Burundi.

4kandi bahevye imitwe yabo ngo icibwe kugira ngo bakize amagara yanje. Si jewe jenyene ndabashima, ariko n'amashengero yose yo mu banyamahanga arabashima.

5Kandi muntahirize ishengero ryo mu nzu yabo. Muntahirize Epayineto, uwo nkunda, ni we yatanguriye abo muri Asiya babaye aba Kristo.

6Muntahirize Mariya yabakoreye cane.

7Muntahirize Andironiko na Yuniya, dusangiye umuryango, ababohanywe nanje, ni ba rurangiranwa mu ntumwa, ni bo bantanze kuba muri Kristo.

8Muntahirize Ampuliyato, uwo nkunda mu Mwami wacu.

9Muntahirize Urubano, dukorana muri Kristo, na Sitaku, uwo nkunda.

10Muntahirize Apele yagejejwe akarama muri Kristo. Muntahirize abo mu bo kwa Arisitobulo.

11Muntahirize Herodiyoni dusangiye umuryango. Muntahirize abo mu bo kwa Narukiso, abari mu Mwami wacu.

12Muntahirize Tirufayina na Tirufosa, bakorera mu Mwami wacu. Muntahirize Perusi akundwa, yakoreye mu Mwami cane.

13Muntahirize Rufo, yatoranijwe n'Umwami, na nyina ni nka mama.

14Muntahirize Asunkirito, Fulegoni, Herume, Patiroba, Heruma n'abavukanyi bari kumwe na bo.

15Muntahirize Filologo na Yuliya, na Nereyu na mushiki we, na Olumpa n'abera bose bari kumwe na bo.

16Muramukanishe kugumbirana kwera. Amashengero ya Kristo yose arabaganutsa.

17Ariko bavukanyi, ndabinginga kwitegereza abazana ivyo gutandukanya n'ibitsitaza, bidahura n'ivyo mwize, mubazibukire.

18Kuko abameze batyo, batajakariye Umwami wacu Kristo, ariko bajakariye inda zabo, kandi bohesha imitima y'aberanda amajambo meza n'ivyo kubanezereza.

19Igitumye ndababwira ivyo, ni uko kwumvira Imana kwanyu kwamamaye mu bantu bose. Ni co gitumye ndabanezererwa, ariko ndagomba ko muba abanyabwenge ku vyiza, mukaba abatungu ku bibi.

20Imana nyene amahoro izofyonyorera Satani vuba musi y'ibirenge vyanyu. Ubuntu bw'Umwami wacu Yesu Kristo bubane namwe.

21Timoteyo, dukorana, arabaganutsa, bo na Lukiyosi na Yasona na Sosipatiro, dusangiye umuryango.

22Nanje Terutiyo, nanditse iki cete, ndabaganutsa mu Mwami wacu. “

© 2007 Bible Society of Burundi.

23Gayo arabaganutsa, ni we yampaye indaro, kandi yakiriye n'abo mw'ishengero bose. Erasito, aganza ivyo ikori ry'iki gisagara, na Kwaruto umuvukanyi wacu, barabaganutsa.

[ 24Ubuntu bw'Umwami wacu Yesu Kristo bubane namwe mwese. Amina. ]

25Imana ishobora kubakomeza, nk'uko ubutumwa bwiza nahawe n'ukwigisha ivya Yesu Kristo bivuga, bihura no guhishurwa kw'ibanga ryahozwe uhereye kera hose,

26ariko muri iki gihe riraserutse, kandi ivyanditswe n'abavugishwa n'Imana birimenyesheje amahanga yose, nk'uko Imana ihoraho yageze, kugira ngo bumvire Imana babiheshwa no kwizera,

27Imana ifise ubwenge yonyene, icubahiro kibe icayo kubwa Yesu Kristo, ibihe bitazoshira. Amina. "

© 2007 Bible Society of Burundi.

# Korinto Rya Mbere 1

1Jewe Pahulo, nahamagariwe kuba intumwa ya Yesu Kristo, nk'uko Imana yagomvye, na Sositene umuvukanyi, “

2turabandikiye mwebwe abo mw'ishengero ry'Imana ry'i Korinto, bejejwe muri Kristo Yesu, bahamagariwe kuba abera, hamwe na bose bambariza ahantu hose izina ry' Umwami wacu Yesu Kristo, ni we Mwami wabo n'uwacu.

3Ubuntu n'amahoro bibe muri mwebwe, biva ku Mana Data wa twese no ku Mwami Yesu Kristo.

4Ndashima Imana yanje na ntaryo ku bwanyu, kubwo ubuntu bw'Imana mwaherewe muri Kristo Yesu; “

5kuko muri vyose mwatungiye muri we, mu vyo muvuga vyose, no mu bwenge bwose,

6kuko ugushingira intahe Kristo kwakomejwe muri mwebwe.

7Bituma mutagira ingabire n'imwe muhaza, mwiteze guhishurwa kw' Umwami wacu Yesu Kristo.

8Ni we azobakomeza gushitsa kw'iherezo, kugira ngo ntimuzogawe kuri wa musi w'Umwami wacu Yesu Kristo.

9Imana ni iyo kwizerwa, yabahamagariye kugirirana ubumwe n'Umwana wayo Yesu Kristo Umwami wacu.

10Ariko ndabinginga, bavukanyi, mw'izina ry'Umwami wacu Yesu Kristo, mwese mube imvugarimwe, kandi n'ibice ntibiremwe muri mwebwe, ariko mutunganywe rwose hamwe, muhuje umutima n'inama.

11Kuko nabariwe ivyanyu, bavukanyi banje, n'abo kwa Kilowe, yuko hari imitongano muri mwebwe.

12Ico mvuze, yuko umuntu wese muri mwebwe avuga ati: "Jeho ndi uwa Pahulo;" uwundi ati: "Jeho ndi uwa Apolo;" uwundi ati: "Jeho ndi uwa Kefa;"uwundi ati: "Jeho ndi uwa Kristo.”

13Mbega Kristo aragabanijwemwo ibice? Pahulo yarababambiwe? Canke mwabatijwe mw'izina rya Pahulo?

14Nshimira Imana yuko ata n'umwe nabatije muri mwebwe, atari Kirisipo na Gayo;

15kugira ngo ntihagire umuntu avuga yuko mwabatijwe mw'izina ryanje.

16Kandi nabatije n'abo kwa Stefana: atari abo, sinzi ko hari uwundi nabatije.

17Kuko Kristo atantumye kubatiza, ariko yantumye kuvuga ubutumwa bwiza, ntavugishije ubwenge bw'amajambo, kugira ngo umusaraba wa Kristo ntucike ubusa.

© 2007 Bible Society of Burundi.

18Kuko ijambo ry'umusaraba ku bahona ari ubupfu, ariko kuri twebwe abakizwa ni ubushobozi bw'Imana.

19Kuko handitswe, ngo nzohonya ubwenge bw' abanyabwenge, N'ubuhanga bw'abahanga nzobuhindura ubusa.

20Umunyabwenge ari hehe? Umwanditsi ari hehe? Umunyabihari wo muri iki gihe ari hehe? Mbega Imana ntiyahinduye ubupfu ubwenge bw'iyi si?

21Kuko naho ubwenge bw'Imana bwageze yuko abo isi batazohabwa n'ubwenge bw'isi kumenya Imana, Imana yahimbawe gukirisha abayizera ubupfu bw'ivyigishwa.

22kuko Abayuda basaba ibimenyetso, Abagiriki barondera ubwenge,

23ariko tweho tubabarira ivya Kristo yabambwe. Uwo ku Bayuda ni ikigwisha, ku banyamahanga ni ubupfu.

24Ariko ku bahamagarwa, b'Abayuda n'Abagiriki, ni Kristo, ubushobozi bw'Imana, kandi ni ubwenge bw'Imana.

25Kuko ubupfu bw'Imana burusha abantu ubwenge; kandi n'intege nke z'Imana zirusha abantu inkomezi.

26Nimwibuke ihamagarwa ryanyu, bavukanyi, yuko abo ubwenge bw'abantu bahamagawe atari benshi, abakomeye bahamagawe atari benshi, abapfasoni bahamagawe atari benshi.

27ariko Imana yatoranije ibipfu vyo mw'isi, ngo imaramaze abanyabwenge; kandi yatoranije ibinyantege nke vyo mw'isi ngo imaramaze ibikomeye,

28kandi n'ivyoroshe vyo mw'isi, n'ibikengerwa, mbere n'ibitariho, Imana yarabitoranije ngo ititure ibiriho;

29kugira ngo ntihagire umuntu yirata imbere y'Imana.

30Ni yo ibaha kuba muri Kristo Yesu, yaduhindukiye ubwenge buva ku Mana, n'ukugororoka n'ukwezwa n'ugucungurwa;

31kugira ngo bibe nk'uko handitswe hati: "Uwirata, yirate Uhoraho."

## Korinto Rya Mbere 2

1Nanje, bavukanyi, hamwe nabasanga i wanyu, sinaje ndi agakura mu majambo canke mu bwenge, mu kubamenyesha ibanga ry'Imana.

2Kuko nagabiye kutagira ico menya muri mwebwe, atari Yesu Kristo, we yabambwe.

3Ariko nabana namwe mfise intege nke, ndi n'ubwoba, mpinda agashitsi kenshi,

4imvugo yanje ni ukwigisha kwanje ntivyarimwo amajambo y'ubwenge yo kwemeza abantu, ariko vyaserukamwo Mpwemu n'ubushobozi,

© 2007 Bible Society of Burundi.

5kugira ngo ukwizera kwanyu ntiguhagarare mu bwenge bw'abantu ariko guhagarare mu bushobozi bw'Imana.

6Yamara, tuvugana ubwenge hagati mu batunganijwe rwose, ariko ubwo bwenge si ubwo iki gihe, canke ubwo abaganza b'iki gihe bagenda bayoka.

7Ariko tuvugishwa n'ubwenge bw'Imana bwari bwaragizwe ibanga, bwari bwaranyegejwe, ubwo Imana yagabiye kera, ibihe vyose bitarabaho ko buzoba icubahiro cacu.

8Kandi mu baganza b'iki gihe nta wabumenye. Iyo baba barabumenye ntibaba barabamvye Umwami w'icubahiro.

9Ariko nk'uko handitswe, ngo ivyo ijisho ritigeze kubona, n'ivyo ugutwi kutigeze kwumva, Ibitigeze kwinjira mu mutima w'umuntu, Vyose Imana yabiteguriye abayikunda.

10Ariko Imana yabiduhishuriye muri Mpwemu wayo; Mpwemu asesa vyose, n'ibihishijwe vy'Imana.

11Ni nde mu bantu azi ibiri mu muntu, atari impwemu yiwe, iri muri we? Ni ko n'ivyo Imana biri, nta wubizi, atari Mpwemu w'Imana.

12Ariko tweho ntitwahawe impwemu y'iyi si, ariko twahawe Mpwemu ava ku Mana, kugira ngo tumenye ivyo Imana yatugabiye.

13Na vyo nyene turabivuga, ariko ntitubivuga mu majambo yigishwa n'ubwenge bw'abantu, ariko tubivuga mu yigishwa na Mpwemu, tugereranya ivyo impwemu n'ivyo impwemu bindi.

14Ariko umuntu afise umubiri n'ubwenge gusa ntiyemera ivya Mpwemu w'Imana; kuko ari ubupfu kuri we, kandi ntashobora kubimenya, kuko vyitegerezwa mu buryo bw'impwemu.

15Ariko umuntu w'impwemu asesa vyose, kandi ubwiwe nta wumusesa.

16Ni nde yigeze kumenya ivyiyumviro vy'Uhoraho ngo yigishe Uhoraho? Ariko twebwe dufise ivyiyumviro vya Kristo.

## Korinto Rya Mbere 3

1Ku bwanje, bavukanyi, sinshoboye kubabwira nk' abo impwemu, ariko nababwiye nk' abaganzwa n'akameremere k'imibiri yabo, nk'abana b'inzoya bo muri Kristo.

2Nabaramije amata, sinabagaburiye ivyo kurya bigumye; kuko mutaribwabishobore. Kandi na none ntimurabishobora,

3kuko mukiganzwa n'ivyo akameremere kanyu. Ko muri mwebwe hari ishari n'ugutongana, ntimuganzwa na vyo? Ntimugenda nk'abantu?

4Umuntu umwe ko avuga ati: "Jeho ndi uwa Pahulo," uwundi ati: "Jeho ndi uwa Apolo, ntimuri abantu se?"

© 2007 Bible Society of Burundi.

5None Apolo ni igiki? Kandi Pahulo ni igiki? Mbega si abakozi batumye mwizera Imana, nk'uko Imana yahaye umuntu wese?

6Ni jewe nateye imbuto, Apolo arazivomera, ariko Imana ni yo yazikujije.

7Nuko uwuzitera nta co amaze, canke uwuzivomera, atari Imana ikuza.

8Uwuzitera n'uwuzivomera ni bamwe. Ariko umuntu wese azogererwa nk'uko yakoze igikorwa ciwe;

9kuko Imana ari yo dukorana, namwe muri imirima y'Imana, muri inzu yubakwa n'Imana.

10Nk'uko nahawe ubuntu n' Imana, nashizeho umushinge, nk'umwubakisha mukuru w'ubwenge, uwundi yubakako. Ariko umuntu wese ni yiyubare uko yubakako.

11Kuko irindi tanguriro ata muntu ashobora kurishiraho, atari iryashizweho, ni ryo Yesu Kristo.

12Ariko iryo tanguriro, umuntu ni yaryubakishako izahabu, canke ifeza, canke amabuye y'igiciro kinini, canke ibiti, canke ubwatsi, canke ibishakashaka,

13igikorwa c'umuntu wese kizoseruka. Wa musi uzogiserura, kuko uzohishuranwa n'umuriro, kandi igikorwa c'umuntu wese uwo muriro uzokigeza ico kirimwo.

14Igikorwa c'umuntu, ico yubatse kuri iryo tanguriro, ni carama, azohabwa ingero;

15igikorwa c'umuntu ni casha, azobura ingero, yamara ubwiwe azokira, ariko nk'uwokowe mu muriro.

16Mbega ntimuzi yuko muri urusengero rw'Imana, kandi ko Mpwemu w'Imana mubana?

17Umuntu ni yonona urusengero rw'Imana, Imana izomurandura; kuko urusengero rw'Imana ari urwera, kandi urwo rusengero ni mwebwe.

18Ntihakagire umuntu yihenda; umuntu wo muri mwebwe ni yiyumvira ko ari umunyabwenge ku vy'iki gihe, abe igipfu, kugira ngo abone kuba umunyabwenge.

19Kuko ubwenge bw'iyi si ari ubupfu ku Mana. Kuko handitswe, ngo itegesha abanyabwenge ubugunge bwabo.

20Kandi ngo Uhoraho arazi ivyiyumviro vy' abanyabwenge, kandi ko bitagira ikimazi.

21Nuko ntihakagire umuntu yirata abantu. Kuko vyose ari ivyanyu;

22ari Pahulo, canke Apolo, canke Kefa, canke isi, canke ubugingo, canke urupfu, canke ibiriho, canke ibizoba, vyose ni ivyanyu,

23namwe muri aba Kristo, Kristo ni uwo Imana.

## Korinto Rya Mbere 4

© 2007 Bible Society of Burundi.

1 Umuntu ni atwiyumvire yuko turi abakozi ba Kristo, n'abanyabigega b'amabanga y'Imana.

2 Kandi ababwiriza abagomba ko babona ari abizigirwa.

3 Ariko kubwanje ni nk'ubusa rwose gucirwa urubanza namwe, canke n'urukinja rw'abantu; kandi nanje nyene sinicira urubanza.

4 Kuko ata co niyiziko, ariko si co kingira umwere; ariko uwuncira urubanza ni Umwami wacu.

5 Ni co gituma mudakwiye guca urubanza rw'ikintu na kimwe igihe carwo kitarashika, ni co kuza kw'Umwami wacu, azomurika ivyari vyanyegejwe mu mwiza, kandi azogaragaza inama zo mu mitima; ni ho umuntu wese azohabwa n'Imana ishimwe rimukwiye.

6 Ariko, bavukanyi, ivyo ndavyigereranijeko, jewe na Apolo, ku bwanyu, nk'igishushanyo; kugira ngo ivyo mvuze kuri twebwe bibigishe kutarenga ivyanditswe; ntihagire umuntu yikakisha arwana ishaka ry'umwe akagaya uwundi.

7 Ni nde aguteye kwitandukanya n'abandi? Kandi ico ufise utahawe ni igiki? Ariko namba waragihawe, ni igiki gituma wirata, nk'uwutagihawe?

8 Mumaze guhaga; mumaze gutunga; mwimitse nk'abami, tutarimwo. Erega icompa mukaba mwarimitswe, kugira ngo natwe twimikanwe namwe.

9 Kuko niyumvira yuko twebwe intumwa, Imana yatwerekanye nk'abari hasi inyuma ya bose, nk'abagerewe kwicwa, kuko twacitse akarorero mw'isi, mu bamarayika no mu bantu.

10 Twebwe turi ibipfu kubwa Kristo; mweho muri abanyabwenge muri Kristo. Turi abanyantege nke, muri abanyabushobozi; muri abanyacubahiro, turi inkengerwa.

11 Gushitsa n'ubu twishwe n'inzara n'inyota, twambaye ubusa, dukubitwa ibipfunsi, tubura uburagamo.

12 Dukoresha amaboko yacu tugatama. Iyo badutuka turabahezagira, iyo baduhama turihangana,

13 iyo batwambika ibara turabahoyahoya. Twahindutse umwavu w'isi, n'udukokorwa kuri bose gushitsa n'ubu.

14 Ivyo sindavyandikiye kubatetereza, ariko ni nko kubahanura, nk'abana banje nkunda.

15 Kuko naho mufise muri Kristo ababarera ibihumbi icumi, ntimufise ba so benshi, kuko ari jewe nabavyaje ubutumwa bwiza muri Kristo Yesu.

16 Nuko ndabinginga, munyigane.

© 2007 Bible Society of Burundi.

17Ni co gituma ndabatumyeko Timoteyo, umwana wanje nkunda, agamburukira Umwami wacu; azobibutsa inzira zanje zo muri Kristo, nk'uko nigisha hose mu mashengero yose.

18Ariko bamwe bivyimvya, biyumvira yuko ntazoza i wanyu.

19Ariko nzoza vuba, Umwami wacu ni yabigomba; kandi si amajambo y'abivyimvya nzomenya, ariko n'ubushobozi bwabo.

20kuko ubwami bw'Imana atari ubwo amajambo, ariko n'ubwo ubushobozi.

21Mugomba iki? Ko nza i wanyu nzanye inkoni, canke ko nzana urukundo n'umutima w'ubugwaneza?

## Korinto Rya Mbere 5

1Inkuru yamamaye hose yuko muri mwebwe hariho ubusambanyi; kandi ubwo busambanyi butoba no mu banyamahanga, kubona umuntu gucikiza muka se ngo amurongore.

2Namwe mukikakisha, ntimubabare, nk'uko mwari mukwiye, kugira ngo uwakoze ico caha akurwe muri mwebwe.

3Ku bwanje naho ntariho ku mubiri, ariko ndiho mu mpwemu, nahejeje gutsindisha uwakoze ibimeze bityo nk'aho ndiho,

4mw'izina ry'Umwami Yesu mwebwe n'impwemu yanje dukoranye dufise ubushobozi bw'Umwami wacu Yesu,

5guha Satani umeze atyo, kugira ngo umubiri wiwe uranduke, ubugingo bwiwe buzorokoke ku musi w'Umwami Yesu.

6Kwirata kwanyu si kwiza. Ntimuzi yuko umwambiro muke wambira irobe ryose?

7Nuko ni mukureho umwambiro wa kera, kugira ngo mube irobe rishasha, nk'uko mutarimwo umwambiro. Kuko umwagazi w'intama wa Pasika wacu watanzwe ko ishikanwa, ari we Kristo.

8Nuko tuziririze imisi mikuru, tudafise umwambiro wa kera, canke umwambiro w'urwanko n'ikibi, ariko tugire imitsima itambiwe y'imitima ikeye ni ukuri.

9Nabandikiye muri ca cete ko mutivanga n'abasambanyi.

10Ariko sinavuga abasambanyi bo mu b'iyi si, canke abifuza, canke abasahura, canke abasenga ibigirwamana, kuko iyo biba bityo mwari mukwiye kuva mw'isi.

11Ariko burya nabandikiye ko mutivanga n'uwitwa umuvukanyi, namba ari umusambanyi, canke uwunohoka, canke uwusenga ibigirwamana, canke uwutukana, canke uwuborerwa, canke umunyazi; umeze atyo, no gusangira ntimugasangire na we.

12Mpuriye hehe no gucira urubanza abo hanze? Mbega si mwebwe mucira urubanza abo muri mwebwe?

© 2007 Bible Society of Burundi.

13ariko abo hanze Imana ni yo izobacira urubanza. Ni mukure umunyakibi muri mwebwe.

## Korinto Rya Mbere 6

1Mbega hari uwo muri mwebwe yogira ico apfa n'umuvukanyi wiwe, akubahuka kuburanira ku bagabitanya, ntaburanire ku bera?

2Ntimuzi yuko abera ari bo bazocira abo isi urubanza? Kandi ko ari mwebwe muzocira abo isi urubanza, none ntimubereye guca imanza ntonto?

3Ntimuzi yuko tuzocira abamarayika urubanza? None ntiturushiriza kuba abo guca imanza z'ivyo ubu bugingo?

4Nuko, iyo mufise imanza zo guhimburwa igikoba c'ubugabo z'ivyo ubu bugingo, mbega mushiraho abatagira ico bamariye ishengero ngo abe ari bo bazica?

5Ndabivugiye kubatetereza. Mbega vyoshoboka yuko muri mwebwe hatagira umunyabwenge n'umwe yoshobora gucira urubanza abavukanyi?

6Ariko umuvukanyi akaburana n'uwundi muvukanyi, kandi bakaburanira no ku batizera!

7Mbere n'ubu hari ico muhomvye rwose, kuko musubiranamwo mukaburana. Ntimwopfuma mugirirwa nabi? Ntimwopfuma mwemera kugungwa?

8Ariko ni mwebwe mugiriranira nabi, mugungana, kandi abo mugirira mutyo ni abana ba So.

9Ntimuzi yuko abagabitanya batazoragwa ubwami bw'Imana? Ntimuzimire; abashurashuzi, canke abasenga ibigirwamana, abasambanyi, abagabo basambana, abagabo basambana n'abandi bagabo,

10ibisuma, abifuza, imborerwa, abatukana canke abasahura, ntibazoragwa ubwami bw'Imana.

11Kandi bamwe muri mwebwe ni ko mwari muri; ariko mwaruhagiwe, ariko mwarejejwe, ariko mwatsindanishirijwe mw'izina ry'Umwami Yesu Kristo no muri Mpwemu w' Imana yacu.

12Vyose ndavyemererwa, ariko si vyose bingirira ikimazi. Vyose ndavyemererwa, ariko sinzoganzwa n'ikintu na kimwe.

13Ivyo kurya ni ivyo inda, n'inda n'iyo ivyo kurya; yamara Imana izobikuraho vyose. Ariko, imibiri yacu si iyo gushegura, mugabo ni iyo Umwami wacu, kandi Umwami ni uwo imibiri yacu.

14Kandi Imana yazuye Umwami, natwe nyene izotuzurisha ubushobozi bwayo.

15Ntimuzi yuko imibiri yanyu ari ingingo za Kristo? None ntore ingingo za Kristo, ndazihindure ingingo z'umumaraya? Biragahera.

© 2007 Bible Society of Burundi.

16Ntimuzi yuko uwimatanya n'umumaraya aba ari umubiri umwe na we? Kuko yavuze iti: "Bompi bazoba umubiri umwe.”

17Ariko uwimatanije n'Umwami wacu aba abaye impwemu imwe na we.

18Muhunge ubushakanyi. Icaha cose umuntu akora si ico umubiri, ariko usheguye aba acumuye ku mubiri wiwe.

19Ntimuzi yuko imibiri yanyu ari insengero za Mpwemu Yera ari muri mwebwe, uwo mufise, avuye ku Mana? Kandi si mwe mwiganza,

20kuko mwaguzwe igiciro. Nuko rero, mushimishe Imana mu mibiri yanyu.

## Korinto Rya Mbere 7

1Ariko ku vyo mwanyandikiye, iciza ni uko umuhungu uwo ari we atohuye n'icitwa umukobwa.

2Ariko ku bwo kwirinda gushurashura, umugabo wese agire umugore wiwe, n'umugore wese agire umugabo wiwe.

3Umugabo ahe umugore wiwe ivyo akwiye, kandi umugore na we abigenze atyo ku mugabo wiwe.

4Kuko umugore ataganza umubiri wiwe, ariko uganzwa n'umugabo; kandi umugabo na we ntaganza umubiri wiwe, ariko uganzwa n'umugore.

5Ntimukimane, kiretse kumbure musezeranye igihe, kugira ngo mubone uburyo bwo gusenga, kandi mwongere mubane, Satani ntabageragereshe kutirinda kwanyu.

6Ariko mvuze ivyo ari ukwemerana, si ivyagezwe ndabagerera.

7Nagomba ko abantu bose bomera nkanje; ariko umuntu wese afise ingabire yiwe ahabwa n'Imana, umwe ukwiwe, uwundi ukwiwe.

8Abatararongorana, bo n'abapfakazi, ndababwira yuko iciza kuri bo ari uko bogumya kumera nkanje.

9Ariko namba badashobora kwirinda barongorane; kuko kwabirana ari kwiza, kuruta gushuha.

10Abamaze kurongorana, ndabagera, ariko si jewe, n'Umwami wacu, umugore ntavane n'umugabo wiwe.

11Aramutse avanye na we, abe igisubiramuhira, canke yisubize hamwe n'umugabo wiwe. Kandi umugabo ntate umugore wiwe.

12Abandi ni jewe ndababwira, si Umwami wacu. Umuvukanyi asanzwe afise umugore atizera, kandi uwo mugore agakunda kubana na we, ntamute.

13Kandi umugore afise umugabo atizera, na we agakunda kubana na we, ntavane n'umugabo wiwe.

© 2007 Bible Society of Burundi.

14 Kuko umugabo atizera yezwa kubwo umugore wiwe, kandi umugore atizera yezwa kubwo uwo muvukanyi. Iyo bitamera bityo, abana banyu baba ari ibihumane, ariko noneho ni abera.

15 Ariko uwutizera, namba agomba kwahukana, ni yahukane. Umuvukanyi w'umugabo canke w'umugore ntahambirwa, iyo bimeze bityo. Imana yaduhamagariye amahoro.

16 Yewe mugore, ubwirwa n'iki yuko uzokiza umugabo wawe? Yewe mugabo, ubwirwa n'iki yuko uzokiza umugore wawe?

17 Ariko gusa, uko Umwami wacu yagabiye umuntu wese, kandi uko Imana yamuhamagaye, kube ari ko amera. Ni ko ngera mu mashengero yose.

18 Mbega hariho umuntu yahamagawe yarahimbuwe igikoba c'ubugabo? Ntagacike nk'uwutagihimbuwe. Hariho umuntu yahamagawe atarahimburwa igikoba c'ubugabo? Ntakagihimburwe.

19 Guhimburwa igikoba c'ubugabo nta co kumaze, no kudahimburwa igikoba c'ubugabo nta co kumaze, ariko ikigira ico kimaze n'ukwitondera ivyagezwe n'Imana.

20 Umuntu wese, uko yari ari mw'ihamagarwa ryiwe, abigumemwo.

21 Wahamagawe uri umushumba? Ntibikubabaze. Ariko, namba bishoboka ko ucika uwidegemvya, ubihitemwo.

22 Uwahamagawe n'Umwami wacu ari umushumba, aba acitse uwidegemvya acunguwe n'Umwami. Ni ko, uwahamagawe n'Umwami ari uwidegemvya, aba acitse umushumba wa Kristo.

23 Mwaguzwe igiciro, ntimukabe abakozi b'abantu.

24 Bavukanyi, umuntu wese uko yari ari aho yahamagarwa, akugumanemwo n'Imana.

25 Ku vyo inkumi, simfise icagezwe n'Umwami wacu; ariko ndababwira ivyo niyumvira, nk'umuntu yagiriwe ikigongwe n'Umwami, ngo mbe umwizigirwa.

26 Nuko ndiyumvira yuko ari vyiza ku bwo igihe kigoye ca none, yuko ari vyiza k'umuntu aguma uko ari.

27 Wahambiriwe ku mugore? Nturondere kubohorwa. Wabohowe ku mugore? Nturondere umugore.

28 Ariko iyo urongoye, nta caha uba ukoze. N'inkumi, iyo irongowe nta caha iba ikoze. Mugabo, abameze batyo bazogira amagorwa mu mubiri, ariko jewe nagomba kuyabakingira.

29 Ariko, bavukanyi, ibi ni vyo mvuga, ko biri ukwo; uhereye none abari n'abagore bamere nk'abatabagira;

30 kandi abarira bamere nk' abatarira, n'abanezerewe bamere nk'abatanezerewe, n'abagura bamere nk'abatagira ico bafise,

© 2007 Bible Society of Burundi.

31n'abakoresha ivy'isi, bamere nk' abatabishishikaye; kuko ukw'isi imeze uku, kugenda gushira.

32Ariko ndagomba ko mutiganyira. Uwutagira umugore yitwaririka ivyo Umwami wacu, uko yonezereza Umwami.

33Ariko uwumufise yitwaririka ivy'isi, uko yonezereza umugore.

34Kandi hariho itandukaniro ku mugore n'inkumi. Uwutarongowe yitwaririka ivyo Umwami wacu, kugira ngo abe uwera ku mubiri no mu mutima; ariko uwabiriwe yitwaririka ivy'isi, uko yonezereza umugabo.

35Ivyo ndabivugiye kubafasha, si ukubashira mu mpururu, ariko n'ukubiroranya, no kugira ngo mukorere Umwami wacu, mudafise imitima ibiri.

36Ariko umuntu ni yaba yiyumvira ko umukobwa wiwe atetererwa, kuko arengeranye ubukumi, kandi kuko bikwiye kuba gutyo, ni agenze uko agomba; nta caha azoba akoze, ni amureke aje kurongorwa.

37Ariko uwukomeye mu mutima wiwe, adafise ikimuhambira, ariko ashobora gukora ivyo agomba ubwiwe, yagabiye mu mutima kuzigama umukobwa bwiwe ngo ntarongorwe, azoba agize neza.

38Nuko uwutanga umukobwa wiwe ngo arongorwe aba agize neza; kandi uwutamutanga aba arushirije kugira neza.

39Umugore aboherwa ku mugabo wiwe akiriho; ariko iyo umugabo apfuye, nta kimubuza gucurwa n'uwo agomba, mugabo rero, ari uwuri mu Mwami wacu.

40Ariko iyo agumye uko ari, ni ho arushiriza guhirwa, uko niyumvira ku bwanje; kandi ngira ngo nanje mfise Mpwemu w'Imana.

## Korinto Rya Mbere 8

1Ku vyo ivyaterekerejwe ibishushanyo vy'ibigirwamana, turazi yuko twese turi n'ubwenge. Ubwenge butuma umuntu yivyimvya, ariko urukundo rurubaka.

2Ni hagira umuntu yiyumvira yuko hari ico azi, azoba ataramenya nk'uko akwiye kumenya.

3Ariko uwukunda Imana ni we amenywa na yo.

4Nuko, ku vyo kurya ivyaterekerejwe ibigirwamana, turazi yuko igishushanyo atari ikintu mw'isi, kandi yuko ata yindi mana iriho, atari Imwe.

5Naho hari ivyitwa ibigirwamana mw'ijuru canke mw'isi, nk'uko hari ibigirwamana vyinshi n'abami benshi,

6ariko kuri twebwe hari Imana imwe, Data wa twese, yandurukwamwo na vyose, natwe twabesherejweho kuba abayo; kandi hari Umwami umwe, ni Yesu Kristo, abeshaho vyose, natwe akatubeshaho.

© 2007 Bible Society of Burundi.

7Ariko ubwo bwenge ntibufiswe na bose; kuko bamwe baremariye mu bigirwamana gushitsa n'ubu, barya ikintu bibwira ko caterekerejwe ikigirwamana, kandi umutima ugahumanywa no kudakomera.

8ariko ivyo kurya si vyo bidushikiriza Imana. Iyo tutabiriye, nta co duhomba; canke iyo tubiriye, nta co duhomboka.

9Mwiyubare, kugira ngo ubwo bushobozi bwanyu ntibube igitsitaza c'abadakomeye na gato.

10Kuko umuntu iyo akubonye, wewe wahawe gutahura, wicaye urira mu rusengero rw'ikigirwamana, umutima w'uwo, iyo adakomeye, mbega ntuzorinduka, ukarya ivyaterekerejwe ibigirwamana?

11Nuko uwudakomeye aba aranduwe no gutahura kwawe, kandi ari we muvukanyi Kristo yapfiriye.

12Nuko iyo mukoreye icaha abavukanyi banyu mutyo, mugakomeretsa imitima yabo idakomeye, muba mukoreye icaha Kristo.

13Ni co gituma namba ivyo kurya bigwisha umuvukanyi, sinzopfa nongeye kurya inyama kugira ngo singwishe umuvukanyi wanje.

## Korinto Rya Mbere 9

1Mbega sindi uwidegemvya? Sindi intumwa? Sinabonye Yesu Umwami wacu? Namwe ntimuri igikorwa canje mu Mwami?

2Namba ku bandi ntari intumwa, ariko kuri mwebwe ndi yo; kuko muri ikimenyetso mu Mwami c'uko ndi intumwa.

3Ibi ni vyo nireguza ku bampinyura:

4mbega ntitwemererwa kurya no kunywa?

5Ntitwokwemerewe kujana n'umugore akijijwe nk'uko izindi ntumwa zikora, n'abavukanyi b'Umwami wacu na Kefa?

6Canke jewe na Barunaba ni twebwe twenyene tutemererwa kureka gukora?

7Ni nde yigeze kwitunga, ari umusoda? Ni nde yotera umurima w'inzabibu ntarye inzabibu zarwo? Canke ni nde yoragira ubusho, ntabunywe?

8Mbega ivyo ndabivuze mu buryo bw'abantu, canke ivyagezwe vyo ntibivuga bityo?

9Kuko handitswe mu vyagezwe vya Mose, ngo ntimuze murumye umunwa w'inka iriko irasekura ingano. Mbega inka ni zo Imana ibabaye?

10Canke se yabivuze kubwacu? Ego me, vyanditswe ku bwacu; kuko umurimyi akwiye kurima afise ivyizigiro, kandi umusekuzi akwiye gusekura yizigiye ko azohabwako.

© 2007 Bible Society of Burundi.

11 Mbega ko twababivyemwo ivyo impwemu, none n'ibikomeye ko twokwimbura ivyanyu vy'umubiri?

12 Abandi namba baravyemerewe kuri mwebwe, mbega ntitubarusha cane? Ariko ntitwarwaniye ivyo twemerewe, yamara twihanganira vyose, kugira ngo ntituzane ikidehesha ubutumwa bwiza bwa Kristo.

13 Ntimuzi yuko abakora ibikorwa vy'ivyera barya ivyo urusengero, kandi abakora ivyo igicaniro basangira n'igicaniro?

14 Kandi n'Umwami wacu ni ko yageze ko abavuga ubutumwa bwiza batungwa n'ubutumwa.

15 Ariko jewe ubwanje nta co narwaniye muri ivyo; kandi sinandikiye ivyo kugira ngo nkorerwe ntyo. Ivyoba vyiza n'uko nopfuma mpfa, hako umuntu ahindura ubusa ivyo vyirato vyanje.

16 Iyo mvuga ubutumwa, singira ico nirata; kuko mfise ikingobera; ntavuze ubutumwa nobona ibara.

17 Ngenjeje ntyo ndabikunze, ndagererwa; ariko ngenjeje ntyo ntabikunze na ho nyene ngoberwa n'ububwiriza nizigiweko.

18 None ingero yanje ni inki? Ni uko ubutumwa, uko ndabuvuze, ndabuvuga ku buntu, kugira ngo sindwanire ivyo nemerewe mu butumwa.

19 Naho kuri bose ndi uwidegemvya, nihinduye umushumba wa bose, kugira ngo ndushirize kuronka benshi.

20 Ku Bayuda nabaye nk'Umuyuda, kugira ngo ndonke Abayuda; ku baganzwa n'ivyagezwe nabaye nk'uwuganzwa na vyo, naho ubwanje ntaganzwa na vyo, kugira ngo ndonke abaganzwa n'ivyagezwe.

21 Ku bataganzwa n'ivyagezwe, nabaye nk'uwutaganzwa na vyo, kugira ngo ndonke abataganzwa n'ivyagezwe, yamara ku Mana ho sindi uwutaganzwa n'ivyagezwe, kuko kuri Kristo nganzwa na vyo.

22 Ku badakomeye nabaye nk'uwudakomeye, kugira ngo ndonke abadakomeye. Kuri bose nabaye vyose kugira ngo nkirishe bamwebamwe uburyo bwose.

23 Kandi ivyo vyose ndabikora kubwo ubutumwa bwiza, kugira ngo mfatanye n'abandi muri bwo.

24 Ntimuzi yuko mu birori abasiganwa biruka bose, ariko uherwa akaba umwe? Namwe mube ari ko mwiruka, kugira ngo muronke impera.

25 Kuko umuntu wese azorushanywa yitegura muri vyose. Abo bagenza batyo, kugira ngo bahabwe igitsibo gishira, ariko twebwe tugenza dutyo kugira ngo duhabwe ikitazoshira.

26 Nuko nanje ndiruka, ariko si nk'uwutazi iyo aja; nkubitana ibipfunsi, ariko si nk'uhusha;

© 2007 Bible Society of Burundi.

27kandi ndwanya umubiri wanje, nkawuhindura umushumba, kugira ngo kumbure maze kwigisha abandi, nanje ubwanje sinze mboneke ko ntemewe.

## Korinto Rya Mbere 10

1Bavukanyi, singomba ko mutamenya yuko ba sogokuruza bose bari musi ya ca gicu, kandi yuko bose baciye hagati ya ca kiyaga cigabanije,

2bose bakabatirizwa kuba aba Mose muri ico gicu no muri ico kiyaga,

3bose bagasangira vya vyo kurya vy'impwemu,

4bose bagasangira vya vyo kunywa vy'impwemu. Kuko banywa ku gitandara c'impwemu cabakurikira, ico gitandara cari Kristo.

5Ariko abenshi muri bo, Imana ntiyabashimye, kuko bahonerejwe mu bugaragwa.

6Ariko ivyo vyatubereye akarorero kugira ngo ntitwifuze ibibi, nk'uko ba bandi bavyifuje.

7Kandi ntimugasenge ibishushanyo vy'ibigirwamana, nk'uko bamwe bo muri ba bandi babisenga; nk'uko handitswe, ngo abantu bicaritswe no kurya no kunywa, bava hasi baravyina.

8Kandi ntitugashurashure, nk'uko bamwe bo muri ba bandi basheguye, maze hagapfamwo abantu ibihumbi mirongo ibiri na bitatu ku musi umwe.

9Kandi ntitukagerageze Umwami wacu, nk'uko bamwe bo muri ba bandi bamugerageje, bakamarwa n'inzoka.

10Kandi ntimukidodombe, nk'uko bamwe bo muri ba bandi bidodomvye, bakamarwa n'umuranduzi.

11Ariko ivyo vyababayeko kugira ngo bitubere akarorero, kandi vyandikiwe kuduhanura twebwe, abashikwako n'amaherezo y'ibihe.

12Nuko rero uwiyumvira ko ahagaze ni yiyubare ntagwe.

13Nta cabagerageje kitari ico umuntu yoshobora kwihanganira. Ariko Imana ni iyo kwizigirwa ntizobakundira ko mugeragezwa n'ibiruta ivyo mushobora, ariko hamwe n'ikibagerageza izobacira icanzo, kugira ngo mubone ingene mushobora kucihanganira.

14Nuko, abo nkunda, ni muhunge gusenga ibigirwamana.

15Ndababwira nk'abanyabwenge; mwiyumvire ivyo mvuga, yuko ari ko biri.

16Igikombe c'umuhezagiro, ico duhezagira, mbega si kwo gusangira amaraso ya Kristo? Umutsima tumanyagura, si kwo gusangira umubiri wa Kristo?

17Nk'uko uwo mutsima ari umwe, twebwe, naho turi benshi, turi umubiri umwe; kuko twese dusangira umutsima umwe.

© 2007 Bible Society of Burundi.

18Murabe Abisirayeli ku rukoba. Abarya ikimazi, mbega ntibasangira n'igicaniro?

19Nuko ico mvuga n'igiki? Mbega mvuga yuko icaterekerejwe ikigirwamana ari ikintu, canke yuko ikigirwamana ari ikintu?

20Ariko mvuga yuko ibimazi abanyamahanga batanga, babiha abadayimoni, babishikanira abadayimoni, ntibabiha Imana. Nanje Singomba yuko musangira n'abadayimoni.

21Ntimushobora kunywera ku gikombe c'Umwami wacu, no ku gikombe c'abadayimoni. Ntimushobora gusangira ivyo ku meza y'Umwami wacu n'ivyo ku meza y'abadayimoni.

22Canke Umwami tumutere ishari? Mbega tumurusha inkomezi?

23Vyose turavyemererwa, ariko ibitugirira ikimazi si vyose. Vyose turavyemererwa, ariko ivyubaka si vyose.

24Ntihagire umuntu ababara ivyiwe, ariko ababare ivyo uwundi.

25Izo zigurwa mw'ibagiro, mube muzirya ata co mubajije kubwo ijwi ryo mu mutima;

26kuko isi ari iyo Uhoraho, n'ibiyuzuye.

27Umuntu wo mu batizera ni yabahamagara, mukagomba kugenda, ico bazoshira imbere yanyu cose, mube mukirya, ata co mubajije, kubwo ijwi ryo mu mutima.

28Ariko ni hagira umuntu ababwira ati: "Ico ni icaterekerejwe; ntimukakirye, kubwo uwo abiseruye, no kubwo ijwi ryo mu mutima.”

29Ariko umutima mvuze si uwawe, ni uwa wa wundi. Ni igiki gituma ukwidegemvya kwanje guhinyurwa n'umutima w'uwundi?

30Ko ndya ndabishimiye, ni igiki gituma ntukirwa ivyo nshimiye?

31Nuko iyo murya, iyo munywa, canke iyo mukora ikindi kintu cose, mube mukorera vyose gushimisha Imana.

32Ntimubere Abayuda igitsitaza, canke Abagiriki, canke ishengero ry'Imana.

33Nk'uko nanje nezereza bose muri vyose, ntarondera ikigira ico kimarira ubwanje, ariko nkarondera ikigira ico kimarira abenshi, kugira ngo bakire.

## Korinto Rya Mbere 11

1Munyigane, nk'uko nanje nigana Kristo.

2Ndabashima, kuko munyibuka muri vyose, mukagumya ivyo nabashikirije, nk'uko nabibahaye.

3Ariko ndagomba ko mumenya k'umutwe w'umugabo wese ari Kristo, kandi k'umutwe w'umugore ari umugabo, kandi k'umutwe wa Kristo ari Imana.

© 2007 Bible Society of Burundi.

4Umugabo wese iyo asenga canke avugishwa n'Imana umutwe wiwe utwikiriye, aba awuteye isoni.

5Ariko umugore wese iyo asenga canke avugishwa n'Imana, adatwikiriye umutwe, aba awuteye isoni; kuko ari bimwe rwose no kumobwa.

6Ni hagira umugore atitwikira mu mutwe, bamumwe n'umushatsi; namba ari ibiteye isoni k'umugore akererwa umushatsi canke ko amobwa ni yitwikire mu mutwe.

7Umugabo ntakwiye kwitwikira mu mutwe, kuko ari ishusho y'Imana n'ubwiza bwayo; ariko umugore n'ubwiza bw'umugabo.

8Kuko umugabo atamutse ku mugore, ariko umugore ni we yamutse ku mugabo.

9Kandi umugabo ntiyaremwe kubwo umugore, ariko umugore ni we yaremwe kubwo umugabo.

10Ni co gituma umugore akwiye kwambara mu mutwe ikimenyetso co kugabwa, kubwo abamarayika.

11Ariko mu Mwami wacu, umugore agenda ku mugabo, ni ko n'umugabo agenda ku mugore.

12Nk'uko umugore yamutse ku mugabo, ni k'umugabo avyarwa n'umugore; ariko vyose vyamuka ku Mana.

13Ni mwiyumvire ubwanyu uko biri. Mbega birakwiye ko umugore asenga Imana atitwikiriye mu mutwe?

14Akameremere kacu mbega ntikabigisha yuko umugabo yotega umushatsi, womutera isoni,

15kandi ko umugore, iyo ateze umushatsi, uba ari ubwiza bwiwe? Kuko yahawe umushatsi ngo ube umwambaro wo mu mutwe.

16Ariko namba hari umuntu agomba kuvyura ibihari, twebwe ntidufise umugenzo nk'uwo, kandi n'amashengero y'Imana ntawufise.

17Ariko uko ndababarira ibi, sindabashima, kuko mudakoranira iciza, ariko mukoranira ikibi.

18Ica mbere, iyo mukoraniye mw'ikoraniro, numva yuko mwitandukanya, kandi ngira ngo muri bimwebimwe vyoba ari ko biri.

19Kuko n'ibice bitobura kubabamwo, ngo abemewe muri mwebwe baseruke.

20Nuko iyo mukoranye, burya ntikuba ari ukurya ingaburo y'Umwami wacu.

21Kuko mu kurya, umuntu wese yisangiza ivyiwe agacura abandi. Maze umwe agasonza, uwundi akaborerwa.

© 2007 Bible Society of Burundi.

22Mbega yemwe; ntimufise ingo zo kuriramwo no kunyweramwo? Canke mukengera ishengero ry'Imana, mugatetereza abadafise? Ndababwire iki? Ndabashime? Kuri ivyo sindabashima.

23Kuko ico nahawe n'Umwami wacu ari co nabashikirije namwe, yuko Umwami Yesu mw'ijoro yaguzwemwo yakiriye umutsima,

24akawushimira Imana, akawumanyagura, akavuga ati: "Uwu ni umubiri wanje ubatangiwe, murahora mugira mutya kugira ngo kibe icibutso canje."

25N'igikombe akigenza atyo, bahejeje kurya, arababwira ati: "Iki gikombe n'isezerano rishasha ryo mu maraso yanje; murahora mugira mutya uko muzonywako, kugira ngo kibe icibutso canje.

26Uko murya uwo mutsima kandi uko munywera kuri ico gikombe, muba mumenyekanisha urupfu rw' Umwami wacu, kugeza aho azozira."

27Ni co gituma, umuntu wese azorya umutsima w'Umwami wacu, canke azonywera ku gikombe ciwe, uko bidakwiye, azotsindwa n'urubanza rw'uko yakengereye umubiri n'amaraso vy'Umwami.

28Ariko umuntu yibaze uko ameze, abone kurya kuri uwo mutsima, no kunywera kuri ico gikombe.

29Kuko uwurya canke uwunywa, atamenye umubiri w' Umwami wacu, arya kandi anywa ibimuzanira gutsindwa n'urubanza.

30Ni co gituma muri mwebwe benshi bagira intege nke, abandi bakarwaragurika, kandi abatari bake bakaba barapfuye.

31Ariko iyo twimenye uko turi, ntidutsindwa n'urubanza.

32Ariko iyo dutsinzwe n'urubanza duhanwa n'Umwami, kugira ngo ntituzotsindwe n'urubanza rudashira hamwe n'abo isi.

33Nuko, bavukanyi banje, uko mukoraniye kurya, murorerane.

34Umuntu ni yasonza, ararya i we, kugira ngo ntimukoranire gutsindwa n'urubanza. Ibisigaye nzobiroranya aho nzozira.

## Korinto Rya Mbere 12

1Bavukanyi, ivyo ingabire za Mpwemu, singomba ko mutabimenya.

2Murazi yuko mukiri injabuka mwakwegwa, mukaja ku bigirwamana bitazi kuvuga, nk'uko mwabikwegeweko.

3Ni co gituma ndabamenyesha yuko ata muntu avugishwa na Mpwemu w'Imana, avuga ati: "Yesu n'ikivume, kandi ata muntu ashobora kuvuga ati: 'Yesu n'Uhoraho, atabivugishijwe na Mpwemu Yera.'"

4Yamara hariho ingabire z'uburyo bwinshi, ariko Mpwemu n'umwe.

© 2007 Bible Society of Burundi.

5Kandi hari amabango menshi, ariko Umwami ni umwe.

6Kandi hariho uburyo bwinshi bwo gukora, ariko Imana n'imwe, ikorera vyose muri bose.

7Yamara, umuntu wese ahabwa ikimwerekanako Mpwemu, kugira ngo bigire ikimazi.

8Kuko umwe aheshwa na Mpwemu ijambo ry'ubwenge, uwundi agaheshwa n'uwo Mpwemu ijambo ryo kumenya.

9Uwundi agaheshwa n'uwo Mpwemu ukwizera, uwundi agaheshwa n'uwo Mpwemu umwe ingabire zo gukiza indwara.

10Uwundi agahabwa gukora ibitangaza, uwundi agahabwa kuvugishwa n'Imana, uwundi agahabwa kurobanura impwemu, uwundi agahabwa kuvuga indimi nyinshi, uwundi agahabwa gusobanura indimi.

11Ariko ivyo vyose uwo Mpwemu umwe ni we abikorera muri bo, agabira umuntu wese uko agomba.

12Nk'uko umubiri ari umwe, ukagira ingingo nyinshi, kandi ingingo z'umubiri zose naho ari nyinshi ari umubiri umwe, ni ko na Kristo ari.

13Kuko muri Mpwemu umwe, twese ari ho twabatijwe ngo tube umubiri umwe, naho boba Abayuda canke Abagiriki, naho boba abakozi canke abidegemvya. Kandi twese twanyweshejwe Mpwemu umwe.

14Umubiri si urugingo rumwe, ariko ni nyinshi.

15Ikirenge covuga kiti: "Ko ntari ikiganza sindi uwo ku mubiri; ivyo ntivyotuma kitaba ico ku mubiri.”

16Kandi ugutwi kwovuga kuti: "Ko ntari ijisho, sindi uwo ku mubiri; ivyo ntivyotuma kutaba ukwo ku mubiri.”

17Iyo umubiri wose uba ijisho, kwumva kwobaye hehe? Iyo wose uba kwumva, kumoterwa kwobaye hehe?

18Ariko noneho Imana yashizeho ingingo z'umubiri, urugingo rwose aho yagomvye.

19Kandi iyo zose ziba urugingo rumwe, umubiri wobaye hehe?

20Ariko noneho, ingingo ni nyinshi, umubiri ukaba umwe.

21Ijisho ntiryoshobora kubarira ikiganza, ngo nta co umariye; canke umutwe kubarira ibirenge, ngo nta co mumariye.

22Ariko uretse ivyo, ingingo z'umubiri ziyumvirwa ko ari izo intege nke inyuma y'izindi, ni zo zitohara;

23kandi izo ku mubiri twiyumvira ko zidafise icubahiro, ni zo zirushiriza kuronka icubahiro; kandi ingingo zacu ziteye isoni ni zo zirushiriza gusharizwa.

© 2007 Bible Society of Burundi.

24Yamara izidateye isoni ntizirinda kwambikwa. Ariko Imana yafatanije umubiri hamwe, urugingo rukenye icubahiro iruha icubahiro kirushiriza,

25kugira ngo umubiri ntiwireme ibice, ariko ingingo zibabarane kumwe.

26Kandi urugingo rumwe iyo rubabaye, ingingo zose zirababazanywa na rwo; canke iyo urugingo rumwe ruhawe icubahiro, ingingo zose zihimbaranwa na rwo.

27Namwe muri umubiri wa Kristo, kandi umuntu wese wo muri mwebwe ni urugingo rwawo.

28Kandi Imana yabanje gushira mw'ishengero bamwe baba intumwa, hanyuma aba kabiri ibashiraho kuba abavugishwa na yo, maze aba gatatu, ibashiraho kuba abigisha, yongera ishiraho abakora ibitangaza, maze ishiraho abahawe ingabire zo gukiza indwara, n'abahawe gufasha abandi, n'abahawe kurongora n'abahawe kuvuga indimi nyinshi.

29Mbega bose ni intumwa? Bose ni abavugishwa n'Imana? Bose n'abigisha? Bose bakora ibitangaza?

30Bose bafise ingabire zo gukiza indwara? Bose bavuga izindi ndimi? Bose basobanura indimi?

31Ariko mwifuze cane ingabire ziruta izindi. Kandi ndabereka inzira irushiriza kuba nziza.

## Korinto Rya Mbere 13

1Naho novuga indimi z'abantu n'izo abamarayika, ariko ntagira urukundo, noba ncitse umuringa uvuga, canke icuma kivuzwa kigasama.

2Kandi naho nogira ingabire yo kuvugishwa n'Imana, nkamenya amabanga yose, n'ubwenge bwose, kandi naho nogira ukwizera kwose, ngashobora gukuraho imisozi, ariko ntagira urukundo, noba ndi ubusa.

3Kandi naho notanga ivyanje vyose, ngo ngaburire aboro, kandi naho notanga umubiri wanje ngo nturirwe, ariko ntagira urukundo, nta co vyomarira.

4Urukundo rurihangana, rugira neza, urukundo ntirugira ishari, urukundo ntirwihayagiza, ntirwihimbaza,

5ntirukora ibiteye isoni, ntirurondera ivyarwo, ntirwiciraho, ntirwiyumvira ikibi ku bantu,

6ntirunezererwa ukugabitanya kw'abandi, ariko runezeranwa n'ukuri;

7rurenzako muri vyose, rwizera vyose, rwizigira vyose, rwihanganira vyose.

8Urukundo nta ho rushira. Ukuvugishwa n'Imana kuzokurwaho, ukuvuga izindi ndimi kuzogira iherezo, ubwenge buzokurwaho.

9Kuko tuzi agace, kandi tuvugishwa n'Imana agace,

© 2007 Bible Society of Burundi.

10ariko, aho igihinguye kizoshikira, ivyo agace bizokurwaho.

11Nkiri umwana mutoya, navuga rwana, niyumvira rwana, nibwira rwana. Maze gukura, mva mu vy'ubwana.

12Kuko ubu turabira mu cirore ivyijiji, ariko ico gihe tuzoraba nk'abarabana imbonankubone. Ubu nzi agace, ariko ico gihe nzomenya rwose nk'uko namenywe rwose.

13None rero hagumyeho ukwizera, n'ivyizigiro, n'urukundo, ivyo uko ari bitatu; ariko ikibiruta n'urukundo.

## Korinto Rya Mbere 14

1Mwirukire urukundo. Yamara mwifuze cane ingabire za Mpwemu, canecane kuvugishwa n'Imana.

2Uvuga ururimi rutamenyekana si abantu abarira, ariko abarira Imana, kuko ata wuvyumva, ariko mu mpwemu avuga amabanga.

3Ariko uwuvugishwa n'Imana, abarira abantu ivyo kubakomeza n'ivyo kubahanura n'ivyo kubirura.

4Uvuga ururimi rutamenyekana ariyubaka, ariko uwuvugishwa n'Imana yubaka ishengero.

5Nagomba ko mwese muvuga indimi zitamenyekana, ariko ikirushiriza, ko muvugishwa n'Imana. Uwuvugishwa na yo aruta uvuga indimi zitamenyekana, kiretse yobisobanura, kugira ngo ishengero ryubakwe.

6Ariko none, bavukanyi, ni naza i wanyu mvuga indimi zitamenyekana, nzobamarira iki, ni ntababarira ivyo mpishuriwe, canke ivyo mpawe kumenya, canke kuvugishwa n'Imana, canke kwigisha?

7Kandi n'ibidafise ubugingo biri n'amajwi: umwironge iyo udatandukanije ijwi, canke inanga, bomenya bate irivuzwa canke iricurarangwa?

8Kandi n'inzumbeti yovuga ijwi ritamenyekana, ni nde yokwitegura gutabara?

9Namwe ni uko, ururimi rwanyu ni rutavuga ibimenyekana, bazomenya bate ivyo muvuga? Kuko muzoba muvuga ibitwarwa n'umuyaga.

10Amajwi yo mw'isi, naho ari menshi ate, nta ridafise uko risobanurwa.

11Nuko iyo ntamenye uko ijwi risobanurwa, uno avuga mba ndamubereye uwudebagura, kandi nanje, uno avuga aba ambereye uwudebagura.

12Namwe ni uko, kuko mwifuza ivya Mpwemu, kuremesha ishengero kube ari kwo gutuma mugomba kurushiriza.

13Nuko uwuvuga ururimi rutamenyekana asenge, kugira ngo ahabwe kubisobanura.

© 2007 Bible Society of Burundi.

14Iyo nsenga mu rurimi rutamenyekana, impwemu yanje irasenga, ariko ubwenge bwanje buragumbaha.

15Nuko ngire nte? Nzosengesha impwemu yanje, ariko kandi nzosengesha n'ubwenge. Nzoririmbisha impwemu yanje, ariko kandi nzoririmbisha n'ubwenge.

16Iyo ushimye Imana, ushimishije impwemu yawe yonyene, mbega uri ku ruhande rw'abatungu yoshobora ate kuvuga ati: "Amina, ni waheza gushima, kandi atamenye ico uvuze?"

17Ni ukuri ku bwawe ushima neza, ariko wa wundi ntakomezwa.

18Nshimira Imana yuko ndabarusha mwese kuvuga indimi zitamenyekana.

19Ariko mw'ishengero nopfuma mvugisha ubwenge bwanje amajambo atanu, kugira ngo nigishe n'abandi, hako mvuga amajambo ibihumbi icumi mu rurimi rutamenyekana.

20Bavukanyi, ntimube abana mu bwenge, ariko mube ibitazi mu bibi; ariko mu bwenge mube abagabo.

21Mu vyagezwe handitswe, ngo nzovuganira n'ubu bwoko mu kanwa k'abavuga izindi ndimi no mu kanwa k'abanyamahanga, ariko naho nzovuga ntyo, ntibazonyumvira, ni ko Uhoraho avuze.

22Ni co gituma indimi zitamenyekana zitabera abizera ikimenyetso, ariko zikibera abatizera. Ariko kuvugishwa n'Imana kwo, ntikubera abatizera ikimenyetso ariko kukibera abizera.

23Nuko ishengero ryose, iyo rikoraniye hamwe, bose bakavuga indimi zitamenyekana, hakinjiramwo abatungu canke abatizera, ntibovuga yuko mwasaze?

24Ariko bose iyo bavugishwa n'Imana, hakinjiramwo uwutizera canke umutungu, yomenyeshwa ivyaha vyiwe na bose, agahinyuzwa na bose.

25Ibihishijwe mu mutima wiwe bigaseruka; Nuko akubika inda, agasenga Imana, akatura yuko Imana iri muri mwebwe vy'ukuri.

26Ni bite ga bavukanyi? Iyo mukoranye, umuntu wese aba afise indirimbo, canke amajambo yo kwigisha, canke amajambo ahishuriwe, canke ururimi rutamenyekana, canke amajambo yo kurusobanura. Vyose bikorwe kugira ngo abantu bakomezwe.

27Ni haba hariho abavuga ururimi rutamenyekana, havuge babiri canke batatu, badasaga, kandi bavuge bakurikirana, hagire ubisobanura.

28Ariko ni haba hatariho uwubisobanura, uvuga urutamenyekana acereze mw'ishengero, yibwire, kandi abwire Imana.

29Kandi n'abavugishwa n'Imana bavuge ari babiri canke batatu, abandi babigenzure.

30Ariko uwundi yicaye ni yagira ico ahishurirwa, uwabanje ahore.

© 2007 Bible Society of Burundi.

31Kuko mwese mushobora kuvugishwa n'Imana umwumwe, ngo bose bige, bose bahanurwe.

32Impwemu z'abavugishwa n' Imana ziganzwa na bo;

33kuko Imana atari iyo umuvurungano, ariko ni iyo amahoro. Nk'uko bimeze mu mashengero yose y'abera,

34abagore bacereze mw'ishengero, kuko batemerererwa kuvuga. Ariko baganzwe, nk'uko ivyagezwe na vyo bivuga.

35Kandi ni hagira ico bagomba kwiga, babarize abagabo babo i muhira, kuko biteye isoni k'umugore avuga mw'ishengero.

36Mbega kuri mwebwe ni ho ijambo ry'Imana ryandurutse? Canke ryashitse kuri mwebwe mwenyene?

37Ni hagira umuntu yiyumvira ko ari uwuvugishwa n'Imana, canke ko ari uwo impwemu, amenye ivyo ndabandikiye yuko ari icagezwe c'Umwami wacu.

38Ariko, namba hari umuntu atabimenye, ntakabimenye.

39Nuko, bavukanyi banje, mwifuze cane kuvugishwa n'Imana, kandi ntimubuze kuvuga indimi zitamenyekana.

40Ariko vyose bitungane neza, birorane.

## Korinto Rya Mbere 15

1Bavukanyi, ndabamenyesha ubutumwa bwiza, ubwo nababariye, namwe mukabakira, kandi mukabuhagararamwo,

2kandi mugakizwa na bwo, asangwa mukibufashe nk'uko nabubabwiye, kiretse mwoba mwizereye ubusa.

3Kuko nabanje kubashikiriza ico nanje nahawe, yuko Kristo yapfiriye ivyaha vyacu, nk'uko ivyanditswe bivuga,

4agahambwa, akazuka ku musi ugira gatatu, nk'uko ivyanditswe bivuga;

5akiyereka Kefa, maze akiyereka bamwe icumi na babiri,

6akongera akiyerekera hamwe abavukanyi barenga amajana atanu, muri abo abenshi baracariho n'ubu, ariko bamwe barasinziriye.

7Maze yiyereka Yakobo, hanyuma yiyereka intumwa zose.

8Maze hanyuma ya bose nanje aranyiyereka ndi nk'uwavutse atageze.

9Mbere jewe ndi inyuma y'izindi ntumwa zose, sinkwiye no kwitwa intumwa, kuko nahama ishengero ry'Imana.

© 2007 Bible Society of Burundi.

10Ariko ubuntu bw'Imana ni bwo bwatumye mba uko ndi, kandi ubuntu bwayo nagiriwe ntibwabaye ubwo ubusa, ariko natamye kurusha bose; ariko si jewe yamara ni ubuntu bw'Imana bwari kumwe nanje.

11Nuko ari jewe ari abo, ivyo ni vyo tubabarira, namwe ni vyo mwizeye.

12Ariko, ko Kristo avugwa ko yazutse mu bapfuye, bamwe muri mwebwe bavuga bate yuko ata wuzuka?

13Asangwa ata wuzuka, na Kristo ntarakazuka.

14Kandi asangwa Kristo atazutse, ivyo twigisha n'ivyo ubusa, n'ukwizera kwanyu n'uko ubusa.

15Natwe twoba tubonetse ko turi abashingira Imana intahe y'ikinyoma, kuko twayishingiye intahe yuko yazuye Kristo, uwo itazuye, namba abapfuye batazuka.

16Asangwa abapfuye batazuka na Kristo ntarakazuka.

17Ariko asangwa Kristo atazutse, ukwizera kwanyu ni uko ubusa, muracari mu vyaha vyanyu.

18Kandi asangwa bimeze bityo, n'abasinzirir iye muri Kristo barayogeye.

19Asangwa muri ubu bugingo bwonyene ari ho twizigirira Kristo, turusha abandi bantu bose kuba abagowe.

20Ariko noneho Kristo yarazutse mu bapfuye, ni we yashurije abasinziriye.

21Kuko nk'uko urupfu rwazanywe n'umuntu, n'ukuzuka kw'abapfuye kwazanywe n'umuntu.

22Nk'uko Adamu yandukije bose gupfa, ni ko muri Kristo bose bazohindurwa bazima.

23Ariko umuntu wese mu mwanya wiwe; arabatangurira, maze aba Kristo bazobonerwa bazuke, aho azozira.

24Iherezo rizoca rishika, aho azoshikiriza Imana ubwami, ni yo Data wa twese, ni yamara gukuraho ubukuru bwose, n'ububasha bwose, n'ubushobozi bwose.

25Kuko ategerezwa guhangama ku butware bwiwe gushitsa aho azoshirira abansi biwe bose musi y'ibirenge vyiwe.

26Urupfu ni we mumenja w'imperera azoherengetezwa.

27Kuko handitswe, ngo Yamuhaye kuganza vyose, ibishira musi y'ibirenge vyiwe. Ariko ko ivuga iti: "Ahawe kuganza vyose;" biraboneka yuko Iyamuhaye kuganza vyose itabiharurwamwo.

28Ariko ni yamara gushikirizwa inganji ya vyose, ni ho n'Umwana ubwiwe azoganzwa n'Iyamuhaye inganji ya vyose, ngo Imana ibe vyose muri vyose.

29Canke ababatizwa mu gishingo c'abapfuye bazobamarira iki? Asangwa abapfuye batazurwa na mba, ni igiki gituma bababatirizwa?

© 2007 Bible Society of Burundi.

30Natwe Ni igiki gituma twama turi mw'irinde?

31Uko bukeye ndapfa, indahiro ndahiye ni mwebwe vyirato vyanje, ivyo mfise muri Kristo Yesu Umwami wacu.

32Asangwa narwaniye n'ibikoko muri Efeso, ndi mu buryo bw' abantu gusa, bimarira iki? Namba abapfuye batazurwa, ni twirire, twinywere, kuko ejo tuzopfa.

33Ntimuzimire; kubana n'ababi kwonona ingeso nziza.

34Mwisubireko, mugororoke, ntimukore ivyaha; kuko bamwe batazi Imana. Ndabivugiye kubatetereza.

35Ariko umuntu yobaza ati: "Abapfuye bazurwa bate, kandi baza bafise umubiri ki?”

36Wa gipfu we, ico ubiba ntikimera kitabanje gupfa.

37Kandi ico ubiba, ntubiba umutumba uzohaba, ariko ubiba akabuto uko kari, ari nk'ako ingano, canke akandi kose.

38Ariko Imana igaha umutumba, nk'uko yagomvye, kandi akabuto kose igaha umutumba wako ukwako.

39Inyama zose si zimwe; izo abantu ziri ukwazo, n'izo ibikoko ziri ukwazo, n'izo inyoni n'ibisiga ziri ukwazo, n'izo ifi ziri ukwazo.

40Kandi hari imitumba yo kw'ijuru n'imitumba yo kw'isi. Ariko ubwiza bw'iyo kw'ijuru buri ukwabwo; n'ubwo iyo kw'isi buri ukwabwo.

41Ubwiza bw'izuba buri ukwabwo, n'ubwiza bw'ukwezi buri ukwabwo, n'ubwiza bw'inyenyeri buri ukwabwo: kandi inyenyeri ntinganya ubwiza n'iyindi nyenyeri.

42N'ukuzuka kw 'abapfuye ni nk'uko. Habibwa ikibora, hazurwa igitabora.

43Habibwa igikengerwa, hazurwa ico icubahiro. Habibwa ikinyantege nke hazurwa ico inkomezi.

44Habibwa umubiri w'inyama, hazurwa umubiri w'impwemu. Asangwa hariho umubiri w'inyama hariho kandi n'uwo impwemu.

45Kandi uko ni ko handitswe, ngo umuntu wa mbere Adamu yabaye uwufise ubugingo; Adamu wo hanyuma yabaye impwemu itanga ubugingo.

46Ariko ico impwemu si co kibanza, yamara ico inyama ni co kibanza, kigaherukirwa n'ico impwemu.

47Umuntu wa mbere yandurutse mw'ivu, ni uwo umukungugu. Umuntu wa kabiri yandurutse mw'ijuru.

48Nk'uko uwo umukungugu ari, ni ko n'abo umukungugu bandi bari. Nk'uko uwo ijuru ari, ni ko n'abo ijuru bandi bari.

49Kandi nk'uko twambaye ishusho y'uwo umukungugu, ni ko tuzokwambara n'ishusho y'uwo ijuru.

© 2007 Bible Society of Burundi.

50Ariko bavukanyi, ico mvuga, yuko abo inyama n'amaraso badashobora kuragwa ubwami bw' Imana, kandi ibibora bitaragwa ibitabora.

51Ehe, ndababarira akabanga: ntituzosinzira twese, ariko twese tuzohindurwa,

52mu kanya gato, mu kanya nk'ako gukubita ingohe, aho inzumbeti y'iherezo izovugira. Kuko inzumbeti izovuga, abapfuye bakazurwa batagishobora kubora, natwe tuzohindurwa.

53Kuko uwu mubiri ubora ukwiye kuzokwambara ukutabora, kandi uwu mubiri upfa ukwiye kuzokwambara ukudapfa.

54Ariko, uwu ubora ni wamara kwambara ukutabora, n'uwu upfa ni wamara kwambara ukudapfa, ni ho hazoshika rya jambo ryanditswe, ngo urupfu rumizwe n'intsinzi.

55Wa rupfu we, intsinzi yawe iri hehe? Wa rupfu we, uruboyi rwawe ruri hehe?

56Ivyaha ni vyo ruboyi rw'urupfu, kandi ubushobozi bw'ivyaha n'ivyagezwe.

57Ariko Imana ishimwe, iduha gutsinda kubwo Umwami wacu Yesu Kristo.

58Nuko bavukanyi banje nkunda, mukomere ntimunyiganyige, murushirize imisi yose gukora ibikorwa vy'Umwami wacu, kuko muzi yuko ubutame bwanyu atari ubwo ubusa mu Mwami.

## Korinto Rya Mbere 16

1Nuko ku vyo gukoranya ibitabara abera, nk'uko nageze amashengero y'i Galatiya, abe ari ko namwe mukora.

2Ku wa mbere wose w'imisi indwi, umuntu wese muri mwebwe abike i we ibimuhaye uburyo, nk'uko atunze, kugira ngo aho nzozira ntihabe ari ho amashikanwa azokoranirizwa.

3Kandi aho nzoshikira, abo muzoshima, nzobatuma ndabahaye amakete, kugira ngo bajane ivyo ikigongwe canyu i Yerusalemu.

4Kandi namba nzoba nkwiye kugenda nanje, tuzojana Pahulo avuga ko ategekanya kuzoja i Korinto

5Ariko nzoza i wanyu, ni namara guca i Makedoniya; kuko nzorinda gucayo.

6Ariko kumbure nzomarana namwe imisi, canke nzomara n'agatasi, kugira ngo mumperekeze, munsezere neza aho nzoja hose.

7Singomba ko tubonana none ndabakubise rurabwe, ariko nizigira kuzomarana namwe imisi, Umwami wacu ni yankundira.

8Ariko nzotebera muri Efeso gushitsa kuri Pentekote;

9kuko nugururiwe urugi runini ruja mu bikorwa bikomeye, kandi abansi bakaba benshi.

© 2007 Bible Society of Burundi.

10Timoteyo ni yaramuka aje i wanyu, muze mumubabare kugira ngo abane namwe ata bwoba; kuko akora igikorwa c'Umwami wacu nkanje.

11Nuko ntihazogire uwumukengera, ariko muzomuherekeze mumusezere amahoro, azonsange ino, kuko niteze ko azozanana n'abavukanyi.

12Ariko ivyo Apolo umuvukanyi, naramwinginze cane ngo aze i wanyu, azozanane n'abo bavukanyi; ntiyakunda na gatoya kuza none, ariko azoza, ni yabona uburyo.

13Mwame mugavye, mushikame mu kwizera, mube abagabo, mugire inkomezi.

14Ivyo mukora vyose mubikorane urukundo.

15Nuko ndabinginze, bavukanyi, murazi abo kwa Stefana, ko ari bo batanguye mu Banyakaya, kandi ko ari bo bitangiye gukorera abera.

16Nuko namwe mugamburukire abameze batyo, n'uwundi wese afatanije n'abandi muri ico gikorwa, agatama.

17Biranezereye ko Stefana na Forutunato na Akayiko baje; bamaze inkumbu nari ndabafitiye,

18kuko bahembuye umutima wanje, bo n'uwanyu; mwame mwibuka abameze batyo.

19Abo mu mashengero yo muri Asiya barabaganutsa. Akwila na Purisikila barabaganutsa cane mu Mwami wacu, bo n'ishengero ryo mu nzu yabo.

20Abavukanyi bose barabaganutsa. Muramukanishe kugumbirana kwera.

21Uku ni kwo gutasha kwanje Pahulo, kwanditswe n'ukuboko kwanje.

22Ni hagira umuntu adakunda Umwami wacu, arakavumwa. Maran ata.

23Ubuntu bw'Umwami wacu Yesu Kristo bubane namwe.

24Urukundo rwanje rubane namwe mwese muri Kristo Yesu. Amina.

© 2007 Bible Society of Burundi.

# Korinto Rya Kabiri

## Korinto Rya Kabiri 1

1 Jewe Pahulo, intumwa ya Kristo Yesu, nk'uko Imana yagomvye, na Timoteyo umuvukanyi, turabandikiye abo mw'ishengero ry'Imana ry'i Korinto, n'abera bose bari muri Akaya hose.

2 Ubuntu n'amahoro biva ku Mana Data wa twese no ku Mwami Yesu Kristo bubabemwo.

3 Imana y'Umwami wacu Yesu Kristo, ari yo Se, Data wa twese w'imbabazi, kandi Imana yirura imibabaro yose iragahezagirwa,

4 itwirura mu marushwa yacu yose, kugira ngo natwe tubone uko twirura imibabaro abari mu marushwa yose, tuyibiruza uko natwe twiruwe n'Imana.

5 Nk'uko ivyo Kristo yababajwe vyarushirije kutuzako, ni ko n'ukwirurwa kwacu kwarushirije kugwizwa na Kristo.

6 Iyo tubabazwa, kuba ari ukugira ngo bibazanire ukwirurwa, bo n'agakiza; kandi iyo twirurwa, kuba ari ukugira ngo bibazanire ukwirurwa nyene, guserukira mu kwihanganira imibabaro imwe n'iyo natwe tubabazwa.

7 Kandi ivyo tubazigako birashikamye, kuko tuzi yuko, ko dusangiye iyo mibabaro, dusangiye n'ukuyirurwa.

8 Kuko bavukanyi, tutagomba yuko mutamenya amarushwa yatubayeko muri Asiya, ko twaremerewe cane, biruta uko dushobora, bigatuma twihebura ko tutagikiza amagara yacu.

9 Kandi tumenyeshwa mu mitima yuko duciriweko iteka ryo gupfa, kugira ngo ntitwiyizigire ubwacu, ariko twizigire Imana izura abapfuye.

10 Yadukijije urupfu rukomeye rutyo, kandi izodukiza; ni yo twizigira yuko izokwama irudukiza,

11 namwe muhuje imitima yo kudufasha mudusengera, ngo ingabire twaheshejwe na benshi, benshi bayishimire Imana ku bwacu.

12 Kuko ukwirata kwacu ari uku, kandi ijwi ryo mu mitima yacu rirabishingira intahe; ingeso twagirira mw'isi, kandi canecane muri mwebwe, zari ukwera, n'imitima itagira ubugunge iva ku Mana, atari mu bwenge bw' abantu, ariko mu buntu bw'Imana.

13 Kuko ata bindi tubandikira, atari ivyo nyene musoma kandi mwemera, kandi nishimiye ko muzovyemera gushitsa ko iherezo,

14 nk'uko mwatwemeye agace, yuko turi ivyirato vyanyu, nk'uko namwe muzoba ivyacu ku musi w'Umwami wacu Yesu.

15 Kandi nk'uko nizigiye ivyo, nagira ngo nzobanza kuza i wanyu, ngo muhabwe ubuntu ubugira kabiri,

© 2007 Bible Society of Burundi.

16 no kubacako nja i Makedoniya, nkagaruka i wanyu mvuye i Makedoniya, ngo mumperekeze, munsezere neza nja i Yudaya.

17 Nuko aho nagomba gukora ntyo, mbega narahindagurika? Canke ivyo ngabira, ndabigabira mbwirijwe n'akameremere kanje, ngo niburanye nti: "Ego, ego," maze nti: "Oya, oya?”

18 Ariko nk'uko Imana ari iyo kwizerwa, ijambo tubabarira ntituvuga ngo ego, maze ngo oya.

19 Umwana w'Imana Yesu Kristo, umwe twabigisha ivyiwe, twe na Siluwano na Timoteyo, ntiyari ego, kandi ngo abe oya; ariko muri we harimwo ego me.

20 Ivyo Imana yasezeranye uko bingana, muri we ni ho Ego me riri; ni co gituma ari we adutera kuvuga ngo Amina, ngo Imana ishimishwe natwe.

21 Imana ni yo idukomezanya namwe muri Kristo, kandi ni yo yaturobanuje amavuta.

22 Kandi ni yo yadushizeko ikimenyetso, itugwatiriza Mpwemu wayo mu mitima yacu.

23 Ariko Imana ni yo ntanzeko icabona ku bugingo bwanje, icatumye ntongera kuza i Korinto, kwari ukwanka kubababaza.

24 Si uko tuganza ukwizera kwanyu, ariko dukorana namwe mu bibungura umunezero; kuko ukwizera ari kwo muhagazemwo.

## Korinto Rya Kabiri 2

1 Ariko nagabiye mu mutima kutazogaruka i wanyu nzanye umubabaro.

2 Ni nabatera umubabaro, uwuzonezereza ni nde? Si uwo nteye umubabaro nyene?

3 Kandi nandikiye ivyo, kugira ngo aho nzozira sinterwe umubabaro n'abari bakwiye kunezereza; kuko ndabizigira mwese yuko umunezero wanje ari wo wanyu mwese.

4 Nabandikiye mfise intuntu nyinshi, umutima wamvuyemwo, ndira amarira menshi; ntikwari ukugira ngo muterwe umubabaro mwebwe, ariko kwari ukugira ngo mumenye urukundo ndushiriza kubagirira.

5 Ariko namba hari umuntu ateye umubabaro, si jewe awuteye, ariko ni mwebwe awuteye mwese--singomba kubababaza cane, ariko bamwe ni agace.

6 Ico gihano abenshi bamuhanye, kiramaze k'uwumeze atyo.

7 None ni co gituma mukwiye canecane kumuharira, no kumwirura, ngo uwumeze atyo ntarengerwe n'umubabaro usagutse.

8 Nuko ndabinginga mumukomezeko urukundo.

9 Kuko icanteye kubandikira ari iki: kwari ukugira ngo ndabageze, menye uko muri, ko munyumvira muri vyose.

© 2007 Bible Society of Burundi.

[10]Ariko uwo muribuharire wese, nanje ndamuharira; kuko nanje ico mpariye, namba hari ico mparira, ndagihariye ku bwanyu, mu maso ya Kristo,

[11]kugira ngo Satani ntaronke ico adutsindisha, kuko tutayobewe imigabo yiwe.

[12]Ariko aho naja i Tirowa, njanywe n'ubutumwa bwiza bwa Kristo, ngasanga nugururiwe urugi mu Mwami wacu;

[13]nabuze uko nduhuka mu mutima wanje, kuko ntasanzeyo Tito umuvukanyi wanje. Nuko narabasezeye, nja i Makedoniya.

[14]Ariko Imana ishimwe, yama itujana nk'abafashwe mpiri muri Kristo, idutera kwerekana ubumote bwo kumumenyekanisha ahantu hose.

[15]Kuko turi ubumote bwiza bwa Kristo ku Mana, hagati y'abariko barakira n'abariko barahona.

[16]Kuri abo turi agacuku k'urupfu kazana urupfu, kuri ba bandi turi ubumote bw'ubugingo buzana ubugingo. kandi ivyo ni nde abishobora?

[17]Kuko tutari nka bamwe benshi, bacururisha ijambo ry'Imana, ariko tuvuga nk'abatagira ubugunge, bavuga ibiva ku Mana, ni ko tuvuga muri Kristo, imbere y'Imana.

## Korinto Rya Kabiri 3

[1]Mbega dutanguye kwongera kwishimagiza? Canke turinda amakete yo kudushimagiza, mwandikiwe canke mwanditse, nk'uko bamwe bandi bagomba?

[2]Ni mwebwe cete cacu, canditswe ku mitima yacu, ico abantu bose bamenya bagasoma.

[3]Kuko muboneka ko muri ikete Kristo yatwandikishije, nk'uko igikorwa cacu kiri; kitandikishijwe irangi, ariko candikishijwe Mpwemu w' Imana nzima; kitanditswe ku bisate vy'amabuye, ariko canditswe ku bisate ni vyo mitima y'inyama.

[4]Uko ni ko twizigira Imana ku bwa Kristo.

[5]Si uko dushobora ubwacu kwiyumvira ikintu cose nk'aho ari twebwe candurutseko, ariko dushobozwa n'Imana;

[6]ni yo yadushoboje kuba abakozi b'isezerano rishasha, yamara si abakozi b'ivyandikishijwe indome, ariko ni abo impwemu; kuko ivyandikishijwe inyuguti vyicisha, ariko impwemu ihesha ubugingo.

[7]Yamara ubwo bugabuzi bwandikishijwe indome zikorogoshowe mu mabuye bwaganzwa n'urupfu, naho bwari bwazananye n'ubwiza. Ariko ubwo bwiza, naho bwagenda bushira, bwatumye Abisirayeli badashobora gutumbera mu maso ha Mose.

[8]None ko vyabaye bityo, ubugabuzi buganzwa na Mpwemu ntiburushiriza cane kuzanana n'ubwiza?

© 2007 Bible Society of Burundi.

9Ubugabuzi bwo gutsindwa ko ari ubwiza, ubugabuzi bwo kugororoka burushiriza kugira ubwiza bw'akaburarugero.

10Mbere icari gisanganywe ubwiza nta bwiza kigifise, kuko haje ubwiza bukirengeye.

11Igishira ko cari n'ubwiza, igihoraho kirushiriza cane kugira ubwiza.

12Nuko ko dufise icizigiro kingana gityo, tuvuga tutabobotereza na gatoya.

13Ntidusa na Mose, yitwikira mu maso, kugira ngo abisirayeli ntibahange amaso iherezo ry'ubwariko buraherengetera.

14Ariko imitima yabo irakomantara. Kuko gushitsa n'ubu, ca citwikiro kikiriho mu gisomwa c'isezerano rya kera, ntikirakurwaho, kuko muri Kristo ari ho giherera.

15Ariko gushitsa n'ubu, ivya Mose iyo bisomwa ico citwikiro kiba ku mitima yabo.

16Yamara, iyo umuntu ahindukiriye Umwami, ico citwikiro gica gikurwaho.

17Ariko uwo Mwami ni we Mpwemu; kandi aho Mpwemu w'Uhoraho ari, ni ho haba umwidegemvyo.

18Tweho twese, ko tutitwikiriye mu maso, tukerekana nk'icirore ubwiza bw'Umwami, turahinduka, tugashushanywa n'iyo shusho, tukava mu bwiza tukaja mu bundi, nk'abahindurwa n'Umwami, ari we Mpwemu.

## Korinto Rya Kabiri 4

1Ni co gituma tutihebura, kuko dufise ubwo busuku, nk'uko twagiriwe ikigongwe.

2Twanse ibiteye isoni bikorerwa mu mpisho, ntitugenda mu bugunge, ntidufudika ijambo ry'Imana, ariko kwerekana ukuri ni kwo twishimagirisha mu maso y'Imana ku mutima w'umuntu wese.

3Ariko namba ubutumwa bwiza twahawe butwikirwa, butwikirirwa abahona,

4ni bo batizera, bamwe ikigirwamana c'iki gihe cahumye imitima, ngo umuco w'ubutumwa bw'ubwiza bwa Kristo ntubakire, ni we shusho y'Imana.

5Kuko tutigisha abantu ivyacu, ariko tubigisha ivya Kristo Yesu ko ari we Mwami, natwe yuko turi abashumba banyu ku bwa Yesu.

6Imana, imwe yavuze ngo umuco wake, uvuye mu mwiza, ni yo yakiye mu mitima yacu, kwerekana umuco, ni wo kumenya ubwiza bw'Imana buri mu maso ha Yesu Kristo.

7Ariko dufise ubwo butunzi mu nzavya z'ibumba, ngo ubushobozi buhebuje bube ubwo Imana, butavuye kuri twebwe.

8Dusugerezwa impande zose, ariko ntidushika mu mpatane; turazazanirwa, ariko ntituranduka umutima;

9turahamwa, ariko ntiduhebwa; dukubitwa hasi, ariko ntitugwaho.

© 2007 Bible Society of Burundi.

10Imisi yose tugendana mu mubiri urupfu rwa Yesu, ngo ubugingo bwa Yesu na bwo
buserukire mu mubiri wacu.

11Kuko twebwe abariho, na ntaryo dutangwa ngo dupfe baduhora Yesu, ngo ubugingo
bwa Yesu na bwo buserukire mu mubiri wacu uzopfa.

12Nuko rero urupfu rudukoreramwo, ariko ubugingo bubakoreramwo.

13Ariko ko dufise uwo mutima wizera, uboneka mu vyanditswe, ngo nizeye, ni co
catumye mvuga; natwe nyene turizera, ni co gituma tuvuga.

14Kuko tuzi yuko iyazuye Umwami Yesu, natwe izotuzurana na Yesu, kandi
izomudushira, twe namwe.

15Kuko ivyo vyose biba ku bwanyu, kugira ngo ubuntu bw'Imana bwongeranishwe
n'ukugwira kw' abantu, bugwize ishimwe, ngo ritere Imana icubahiro.

16Ni co gituma tutihebura; ariko, naho umuntu wacu wo ku rukoba ariko arabora,
umuntu wacu w'imbere yama ahinduka musha uko bukeye.

17Kuko amarushwa yacu ahwahutse y' akanya ka none yiyongeranije cane
kudushikiriza ubwiza buremereye bw'ibihe bidashira.

18Natwe ntituraba ku biboneka, ariko turaba ku bitaboneka; kuko ibiboneka ari ivyo
igihe gito, ariko ibitaboneka bikaba ivyo ibihe bidashira.

## Korinto Rya Kabiri 5

1Turazi yuko inzu y'urusago yacu yo kw'isi ni yaramuka isambuwe, dufise inyubako
iva ku Mana, inzu itubatswe n'amaboko, itazoshira yo mw'ijuru.

2Kuko tunihira muri uru rusago, twifuza kurwambikirwako inzu yacu izova mw'ijuru,

3namba tuyambaye tutazosangwa twambaye ubusa.

4Kuko twebwe abari muri uru rusago tuniha turemerewe, si uko tugomba
kwamburwa, ariko tugomba kwambikirwa kuri rwo, ngo igipfa kimirwe n'ubugingo.

5Kandi iyaturoranije ku bwo ico nyene n'Imana, iyatugwatirije Mpwemu.

6Ni co gituma na ntaryo turinda mu mutima, kandi tumenya yuko iyo turi i wacu mu
mubiri tuba tugerereye kure y'Umwami wacu— “

7kuko tugenda turongorwa n'ukwizera, ntiturongorwa n'ivyo tubona—

8ego me turinda mu mutima, kandi ico turushiriza gukunda ngiki: ni ukugerera kure
y'umubiri, tukaba i wacu ku Mwami wacu.

9Kandi ni co gituma tugira umwete wo kumunezereza, iyo turi i wacu mu mubiri,
canke iyo tugerereye kure y'umubiri.

10Kuko twese tutazobura kugaragarizwa imbere y'intebe y'imanza ya Kristo, kugira
ngo umuntu wese ahabwe ibihwanye n'ico yakoze akiri mu mubiri, ari ciza ari kibi.

© 2007 Bible Society of Burundi.

[11]Nuko kuko tuzi ingene ukwubaha Umwami wacu kumeze, twemeza abantu, ariko Imana turayigaragarira kandi rero nizigiye yuko tugaragarira n'imitima yanyu.

[12]Ntitwongera kubishimagizako, ariko tubaha inyanduruko y'ingene mwokwirata ku bwacu, kugira ngo mubone ivyo mwokwishura abirata ivyo ku rukoba, batirata ivyo mu mutima.

[13]Namba dusaze, dusaze ivyo Imana; namba dufise ubwenge, ni mwebwe dukorera.”

[14]Kuko urukundo rwa Kristo rutugobera, kandi ico tuzi tudakekeranya ni uko umwe yapfiriye bose, nuko rero bose barapfuye.

[15]Kandi icatumye apfira bose kwari ukugira ngo abariho babeho batacinezereza, ariko babeho banezereza uwabapfiriye, akabazukira.

[16]Ni co gituma kuva ubu tutakigira uwo tumenya ku vyo ku rukoba; naho twari tuzi Kristo mu vyo umubiri, ariko noneho ntitukimumenya dutyo.

[17]Nuko rero umuntu wese iyo ari muri Kristo, aba ari icaremwe gishasha; ivya kera biba bihise, vyose biba bibaye bishasha.

[18]Ariko ivyo vyose biva ku Mana, yatwiyujujeko kubwa Kristo, ikaduha igikorwa c'ukunywanisha,

[19]ni kwo kuvuga yuko Imana yari muri Kristo yiyuzuza n'abari mw'isi, ntiyabaharurako ibicumuro vyabo, kandi yatubikije ijambo ry'umwuzuzo.

[20]Ni co gituma turi intumwa mu gishingo ca Kristo, Imana isa n'iyibaduhanurisha. Turabahanura mu gishingo ca Kristo, mwuzure n'Imana.

[21]Umwe atigeze kumenya icaha, Imana yamuhinduye icaha ku bwacu, kugira ngo tumuhindukiriremwo ukugororoka kw'Imana.

## Korinto Rya Kabiri 6

[1]Kandi ko dukorana na yo, turabinginga, ntimuherwe ubuntu bw'Imana ngo bubapfeko.

[2]Kuko yavuze ati: "Mu gihe co kwemererwamwo ndakwumvise, No ku musi wo gukirizwako ndagutabaye. Ehe ubu ni igihe co kwemererwamwo, ehe ubu ni umusi wo gukirizwako.”

[3]Kandi ntitugira ico tuzana gitsitaza mu kintu na kimwe, kugira ngo kugabura ivyo Imana kwacu ntikugawe.

[4]Ariko twishimagiza muri vyose nk' abakozi b'Imana, twihangana cane mu marushwa, mu mibabaro, mu vyago,

[5]mu bimoko, mu mabohero, mu migumuko, mu butame, mu kurara maso, mu kwiririrwa ubusa,

© 2007 Bible Society of Burundi.

6mu kugira umutima utanduye, mu kugira ubwenge, mu kutarambirwa, mu kuba inda nziza, muri Mpwemu Yera, mu rukundo rutari uruheyiheyi,

7mw'ijambo ry'ukuri, mu bushobozi bw'Imana, dufise ibirwanisho vy'ukugororoka vyo mu kuryo n'ivyo mu kubamfu;

8mu cubahiro no mu gakengerwe, mu mugayo no mw'ishimwe. Twiyumvirwa nk'abanyabinyoma, ariko turi abanyakuri.

9Twiyumvirwa nk'abatamenyekana, ariko turi ba rurangiranwa. Tuboneka nk'abagira bapfe, ariko Raba, turi bazima. Tuboneka nk'abahanwa, ariko ntitwicwa.

10Tuboneka nk'ababababara, ariko tunezerwa imisi yose. Tuboneka nk'aboro, ariko dutungisha benshi. Tuboneka nk'abatagira ico batunze, yamara dutunze vyose.

11Akanwa kacu karabasesekariye, yemwe Bakorinto, umutima wacu uragutse.

12Ntimwagiwe muri twebwe, yamara mwagiwe mu mitima yanyu.

13Nuko ndababwira nk'abana banje, namwe ni mwaguke, mwishure nk'uko mwagiriwe.

14Ntimwifatanye n'abatizera, kandi ata co musangiye. Ukugororoka n'ukugabitanya bifatana bite? Canke umuco n'umwiza bifatanya bite?

15Kandi Kristo ahuriye hehe na Beliyari? Canke uwizera n'uwutizera basangiye iki?

16Kandi urusengero rw'Imana ruhuza rute n'ibigirwamana? Kuko twebwe turi urusengero rw'Imana nzima; nk'uko Imana yavuze iti: "Nzobagereramwo, nzobagenderamwo, Mbe Imana yabo, na bo babe abantu banje.”

17Nuko muve hagati ya ba bandi, Mubitandukanyeko, ni ko Uhoraho avuze, Kandi ntimugakore ku kintu gihumanya na kimwe; Nanje nzobakira.

18Kandi nzobabera So, Namwe muzombera abahungu n'abakobwa, Ni ko Uhoraho ashobora vyose avuze.

## Korinto Rya Kabiri 7

1Nuko bakundwa, ko dufise ivyo vyasezeranywe, twiyuhagire ubuhumane bwose bw'umubiri n'ubwo umutima, kuba abera tugushikishe kwubaha Imana.

2Muduhe ikibanza mu mitima yanyu; nta we twagiriye nabi, nta we twononye, nta we twagunze.

3Sindabivugiye kubagaya; kuko maze kuvuga yuko muri mu mitima yacu, ngo dupfane kandi ngo tubaneho.

4Ndababwira ndabizigiye cane, ndabiratana. Nuzuye ihumure, ndushiriza kunezerwa mu marushwa yacu yose.

5Hamwe twaja i Makedoniya umubiri wacu ntiwaribwatenzukirwe na gatoya, kuko twababajwe uburyo bwose; inyuma hari intambara, imbere hari ubwoba. “

© 2007 Bible Society of Burundi.

6Ariko Imana ihumuriza abicisha bugufi yaduhumurishije ukuza kwa Tito.

7Kandi si ukuza kwiwe kwonyene, ariko kandi ni uguhumurizwa mwamuhumurije namwe, n'uko yatwiganiye inkumbu zanyu mwangiriye, n'amarira yanyu, n'ishaka mwandwanira, ni co catumye ndushiriza kunezerwa.

8Naho nabateje umubabaro ca cete canje, sinicuza, naho nari naricujije; kuko ndabonye yuko ico cete cabateye umubabaro, naho mwawugize igihe gito gusa;

9noneho ndanezerewe; sinejerejwe n'uko mwagize umubabaro, ariko n'uko uwo mubabaro wabateye kwihana. Kuko mwagize umubabaro mu buryo bw' Imana, kugira ngo ntihagire ico mubura ku bwacu.

10Umubabaro wo mu buryo bw'Imana utera ukwihana kuticuzwa, kuzana agakiza; ariko umubabaro wo mu buryo bw'isi utera urupfu.

11Ntimubona uwo mubabaro wo mu buryo bw'Imana, ukuntu wabateye umwete mwinshi utyo? Kandi ko wabateye no kwiregura, guhigimanga, gutinya, inkumbu, ishaka no guhana? Muri vyose mwiyerekanye ko mwejejwe muri ivyo.

12Nuko naho nabandikiye, ivyanyandikishije si ivyo uwagize nabi, kandi si ivyo uwagiriwe nabi, ariko ni ukugira ngo umwete mutugirira werekanirwe hagati yanyu mu maso y'Imana.

13Ni co catumye duhumurizwa. Kandi muri ukwo guhumurizwa turushiriza guterwa umunezero n'umunezero wa Tito, kuko umutima wiwe waruhuwe namwe mwese.

14Namba hari icanteye ko ndabirata ndabaratira Tito, ntivyantetereje; ariko nk'uko twababwiye vyose ukuri, ni ko ni ukwirata kwacu, twaratiye Tito, kwabonetse ko ari ukwo ukuri.

15Kandi umutima wiwe urushiriza kubagirira igishika, uko yibutse ingene mwanyumviye mwese, n'ingene mwamwakiriye mutinya, muhinda agashitsi.

16Nezerewe yuko mfise umutima uremye ku bwo ivyanyu vyose.

## Korinto Rya Kabiri 8

1Bavukanyi, turabamenyesha ubuntu bw'Imana amashengero y'i Makedoniya yagiriwe.

2Bakigeragezwa n'amarushwa menshi, umunezero wabo w'akaburarugero, n'ubworo bwabo butagira iyo buherwa, vyarushirije kuzana ubutunzi bw'ivyo ubuntu bwabo.

3Ku bwabo baratanze nk'uko bashoboye, ndabibashingira intahe, kandi bararushije n'ivyo bashoboye,

4badusaba binginga cane kubatera iteka kugira ngo bafatanye n'abagaburira abera.

5Kandi si nk'uko twabiziga gusa, ariko babanje kwitanga biha Umwami wacu, natwe nyene baratwiha, nk'uko Imana yagomvye.

© 2007 Bible Society of Burundi.

6Ni co catumye twinginga Tito, ngo asozere ico gikorwa c'ugutabara no muri mwebwe, nk'uko yagitanguye kera.

7Ariko nk'uko murushiriza kugira vyose --ukwizera, n'amajambo, ubwenge, umwete mwinshi n'urukundo mudukunda--ni murushirize no kugira ubwo buntu na bwo.

8Sindabivugiye kubategeka, ariko ndabivugiye kugeza urukundo rwanyu ko ari urwo ukuri, ndarugeragereshe umwete w'abandi.

9Kuko muzi ubuntu bw'Umwami wacu Yesu Kristo, yuko naho yari umutunzi, yahindutse umworo ku bwanyu, kugira ngo ubworo bwiwe bubatungishe.

10Kandi ivyo ndababwiye kuri ivyo ni ukubagisha inama; kuko bibabereye, abatanguriye abandi uhereye ku mwaka ushize, si ukubikora gusa, ariko no kubikunda.

11Nuko rero mushitse no kubikora, kugira ngo nk'uko mwakunze kuvyemera, mube ari ko mubishitsa ku vyo mufise.

12Kuko iyo hari umutima ukunze, wemerwa ku vyo umuntu afise, si ku vyo adafise.

13Simvuze ntyo kugira ngo abandi boroherwe, namwe ngo mugorwe.

14Ariko ni ukugira ngo munganye, ngo ibibasagutseko muri iki gihe bibamare ubukene, kandi ngo ibizobabera umusesekara na bo bizobamare ubukene bwanyu, munganye.

15Nk'uko handitswe, ngo uwegeranije vyinshi asanga ata co asesekaje; uwegeranije bike asanga ata co akehaniwe.

16Ariko Imana ishimwe, ishize mu mutima wa Tito kubagirira umwete nk'uwo ndabagirira.

17Kuko yemeye inama yacu, kandi kuko agize umwete mwinshi, aje i wanyu bivuye ku mutima.

18Kandi hamwe n'uwo turungitse n'umuvukanyi ngo bazanane, ishimwe ryiwe ryo ku vyo ubutumwa bwiza ryamamaye mu mashengero yose.

19Kandi si co gusa, ariko na kare uwo ni we yatoranijwe n'amashengero kwama ajana natwe kubwo ico gikorwa c'ugutabara, ubwo tugabura ngo Umwami wacu ashimishwe, kandi ngo twerekane umutima wacu ko ubikunze

20Kuko ico twirinda ari iki, ari ico umuntu yotugaya kubwo izi ngabire nyinshi tugabura.

21Tubabaye gukora ivyiza, si mu maso y' Umwami wacu gusa, ariko no mu maso y'abantu.

22Kandi abo tubarungikanye n'uwo muvukanyi twagejeje kenshi, akaboneka ko ari umunyamwete muri vyinshi, ariko none arushiriza kugira umwete, kuko abizigira cane.

© 2007 Bible Society of Burundi.

23Ivya Tito, ni we dufatanije igikorwa, kandi n'umuvukanyi wanje dukorana ivyanyu; kandi ivyo abo bavukanyi, n'intumwa z'amashengero, kandi n'icubahiro ca Kristo.

24Nuko mubereke ivyerekana urukundo rwanyu mu maso y'amashengero, kandi yuko twari dufise inyanduruko yo kubirata.

## Korinto Rya Kabiri 9

1Ivyo ukugaburira abera sindinda kubibandikira.

2Kuko nzi umutima ukunze wanyu, ni wo nirata mu Banyamakedoniya yuko muwufise, mvuga yuko Abanyakaya bari basanzwe biteguye, uhereye mu mwaka ushize, kandi gushishikara kwanyu kwateye abenshi umwete.

3Kandi ndungitse abo bavukanyi kugira ngo ukubirata kwacu ntikuzopfe ubusa muri ivyo; kugira ngo muzobe mwiteguye nk'uko nababwiye,

4twebwe (sinovuga mwebwe) ntituzomaramazwe n'ivyo twari twizigiye, namba Abanyamakedoniya bamwe bazozanana nanje bagasanga mutiteguye.

5Ni co gitumye niyumviriye yuko nkwiye kwinginga abo bavukanyi kunyitangira imbere mu kuza i wanyu, ngo babanze gutunganya ivyo ubuntu mwasezeranye kera, bibe biteguwe nk'ivyo ugutabara hatarimwo ubwimanyi.

6Ariko ico mvuga ngiki, ngo Ubiba nke, azokwimbura bike, ubiba nyinshi azokwimbura vyinshi.

7Umuntu wese atange nk'uko abigabiye mu mutima wiwe, atababaye canke atagoberewe, kuko Imana ikunda utanga anezerewe.

8Kandi Imana ishobora kubasazako ubuntu bwose, kugira ngo murushirize gukora ivyiza vyose, mufise ibibahagije muri vyose.

9Nk'uko handitswe, ngo Yatanze isabagire, yahaye abakene, Ukugororoka kwiwe kwamaho ibihe bidashira.

10Kandi Iha umubivyi imbuto n'imitsima yo kurya, ni yo izobaha, ibongeranirize imbuto zanyu zo kubiba, kandi izogwiza imbuto z'ukugororoka kwanyu.

11Namwe muzotungishwa muri vyose, ngo mugire ubuntu bwose, butuma dushimisha Imana.

12Kuko igikorwa c'ukwo kugabura kitamara ubworo bw'abera gusa, ariko kandi kirushiriza gushimisha Imana muri benshi.

13Kuko uburyo mwageragejwe n'ukwo kugabura bwatumye abo bahimbaza Imana yuko muwumvira, mwatura ubutumwa bwiza bwa Kristo, kandi yuko mwatabarishije vyinshi vyo kubafasha no gufasha abandi bose.

14Kandi mu kubasengera babagirira inkumbu, kuko ubuntu bw' Imana burushiriza kuba muri mwebwe.

© 2007 Bible Society of Burundi.

15Imana ishimirwe ingabire yayo nziza itovugwa.

## Korinto Rya Kabiri 10

1Jewe Pahulo ubwanje ndabinginga kubwo ubugwaneza n'ineza vya Kristo, jewe umuntu aciye bugufi muri mwebwe imbere yanyu, ariko iyo tutari kumwe ndabubahuka;

2nuko ndabinginga kugira ngo ni twaba kumwe sinzorinde kububahuka, nk'uko niteguye kuzokwubahuka nshize ubwoba, bamwe batwiyumvira ko tugenda dukurikira ivyo akameremere kacu.

3Naho turi n'umubiri ntiturwana mu buryo bw'umubiri,

4kuko ibirwanisho vy'intambara yacu atari ivyo mu buryo bw'umubiri, ariko imbere y'Imana bifise ubushobozi bwo gushingura akarimbi,

5dushingura impari n'igishizwe hejuru cose, kihashiriwe kurwanya ukumenya Imana, dufata mpiri ivyiyumvirwa mu mitima vyose, ngo tubigomorere Kristo.

6Kandi twiteguye guhana ubutumva bwose, aho mwebwe muzogirira ukwumva gushitse.

7Mbega muraba ibibonwa n'amaso? Namba hari umuntu yizigiye ko ari uwa Kristo, yibwire n'ibi, yuko uko ari uwa Kristo, natwe ari ko turi.

8Kuko ububasha bwacu Umwami wacu yaduhaye kugira ngo tububake, ntitubasambure, naho norushiriza kubwirata, sinzomaramazwa;

9sinzokwiyumvirwe nk'uwubateza ubwoba amakete yanje.

10Kuko bavuga bati: "Amakete yiwe arahambaye, arasogota, ariko iyo ari ino, arakengeretse, kandi amajambo yiwe nta co amaze.”

11Uvuga ibisa bityo ni yibwire n'ibi, yuko uko tumeze ku majambo yo mu makete atari ho turi, ari ko tumeze no ku vyo dukora ari ho turi.

12Kuko tutubahuka kwishira mu gitigiri ca bamwe bishimagiza, canke kwigereranya na bo; ariko abo, ko birehesha ubwabo kandi bigereranya ubwabo, nta bwenge bagira.

13Tweho ntituzokwirata ibirenze urugero, ariko tuzokwiyumvira urugero rwacu ko ruhwanye n'urugezo rw'aho Imana yatugereye, ngo dushike no kuri mwebwe.

14Ntiturenga akarimbi kacu, nk'abatabashitseko, kuko twarabashitseko koko, tuzanye ubutumwa bwiza bwa Kristo.

15Ntitwirata ibirenze urugero, ntitwirata ivyo abandi bakoze. Ariko twizigiye yuko ukwizera kwanyu ni kwakura, tuzoshirwa hejuru kubwanyu, ku vyo twagerewe, ngo twagukirwe,

16tuvuge ubutumwa bwiza mu bihugu biri hirya yanyu, kugira ngo ntitwirate ivyo dusanze biteguye, ahagerewe uwundi.

© 2007 Bible Society of Burundi.

17Ariko uwirata yirate Uhoraho.

18Kuko uwishimagiza atari we yemerwa, ariko hemerwa uwo Umwami wacu ashimagiza.

## Korinto Rya Kabiri 11

1Icompa mukanyihanganira ku bupfu buciyemwo, kandi n'ubwo muranyihanganira.

2Ndabafitiye ishari ryo kubwo Imana, kuko nabahaye umugabo umwe, ni we Kristo, ngo ndabamushingire mumeze nk'inkumi itunganye.

3Ariko ndiyubara yuko, nk'uko ya nzoka yahendesheje Eva ukwiyorobeka kwayo, kumbure ivyiyumviro vyanyu vyokwoshwa, mugaca mureka ukugororoka n'ukwera mu vya Kristo.

4Kuko iyo hagize uwuza i wanyu akababarira Yesu wundi, tutababariye, canke iyo mwakiriye iyindi mpwemu mutakiriye, canke ubundi butumwa mutemeye, we muramwihanganira neza!

5Kuko nibwira yuko izo ntumwa zihambaye cane ata co zindusha na gatoya.

6Naho ndi igihwiji mu majambo, sindi igihwiji mu bwenge, kandi ivyo twarabiberetse muri vyose no mu maso ya bose.

7Canke mbega naracumuye kuko nicishije bugufi ngo mushirwe hejuru, ndababwiye ubutumwa bwiza bw'Imana ku busa?

8Nasahuye ayandi mashengero ndayaka ingero, kugira ngo nkorere mwebwe,

9kandi aho nari kumwe namwe ngakena, sinagize uwo ngora; kuko abavukanyi bavuye i Makedoniya Bamaze ubukene. Muri vyose nirinda kubagora, kandi nzoshishikara kuvyirinda.

10Uko ukuri kwa Kristo kuri muri jewe, nta wuzombuza kwirata ntyo mu ntara zo muri Akaya.

11Ni ku ki? Ni uko ntabakunda? Bizi Imana.

12Ariko ivyo nkora nzoshishikara kubikora, kugira ngo mbuze inyanduruko abagomba inyanduruko yo kuboneka nkatwe mu vyo birata.

13Abameze batyo n'intumwa z'ibinyoma, n'abakozi bagunga, bigira intumwa za Kristo.

14Kandi ivyo ntibitangaza, kuko na Satani yigira umumarayika w'umuco.

15Nuko si ikigoye ko abakozi biwe na bo bigira nk'abakozi b'ukugororoka; iherezo ryabo rizohwana n'ibikorwa vyabo.

16Kandi nongere kubivuga. Ntihagire uwunyiyumvira ko ndi igipfu. Ariko ni mwaramuka munyiyumviriye mutyo, munyemere nk'igipfu, kugira ngo nanje nirate gatoya.

© 2007 Bible Society of Burundi.

17 Ivyo mvuga sindabivuga nk'ijambo ry'Umwami wacu, ariko ndabivuga nk'uwuvugishwa n'ubupfu, nizigiye yuko mfise inyanduruko yo kwirata.

18 Ko benshi birata ivyo umubiri, reka nanje nyene ndavyirate.

19 Mwihanganira ibipfu munezerewe, kuko mwibereye abanyabwenge.

20 Murihangana, iyo umuntu abagize abaja, iyo abariye, iyo abafashe, iyo yishize hejuru, iyo abakubise urushi.

21 Ndabivuganye isoni; bisa n'aho tweho twabagizemwo intege nke. Ariko ikintu cose gitera umuntu gushiruka umwete (ndabivugishijwe n'ubupfu) nanje kirabintera.

22 Mbega abo ni Abaheburayo? Nanje ndi we. Ni Abisirayeli? Nanje ndi we. Ni uruvyaro rwa Aburahamu? Nanje ndi rwo.

23 Ni abakozi ba Kristo? (Mvuga nk'umusazi) ndabarusha. Ndabarusha mu butame, ndabarusha gushirwa mu mabohero, ndabarusha mu gukubitwa kurenze urugero; kenshi nari mw'irinde ry'urupfu.

24 Abayuda ibihe bitanu bankubise ibimoko mirongo itatu n'icenda.

25 Ibihe bitatu nakubiswe ingage; igihe kimwe natewe amabuye; ibihe bitatu ubwato bwaramenekanye, naraye mu kiyaga niririwaho;

26 nari mu ngendo kenshi, mw'irinde ry'inzuzi, mw'irinde ry'abambuzi, mw'irinde ry'ubwoko bwacu, mw'irinde ry'abanyamahanga, mw'irinde ryo mu bisagara, mw'irinde ryo mu bugaragwa, mw'irinde ryo mu kiyaga, mw'irinde ryo mu bigira bavukanyi;

27 mu butame no mu bucumukure, ndara maso kenshi, ngira inzara n'inyota, mara ubusa kenshi, nicwa n'imbeho, nambara ubusa.

28 Kandi ntarinze kuvuga ibindi, hari ikinzako uko bukeye, n'umwitwaririko w'amashengero yose.

29 Ni nde adakomera, nanje simbe uwudakomeye? Ni nde agira ikimugwisha, nanje isoni ntizinyice?

30 Namba nkwiye kwirata, nirata ivyo intege nke zanje.

31 Imana y'Umwami Yesu, ni yo Se, ishimwa ibihe bidashira, irazi ko ntabesha.

32 I Damasiko icegera c'umwami Areta carindishije igisagara c'Abanyadamasiko ngo bamfate.

33 Bancisha mu kadirisha k'uruhome rw'amabuye, ndi mu gisangaza, ndahunga ndamuva mu maboko.

## Korinto Rya Kabiri 12

1 Numva mpambirwa kwirata, naho bitagira ikimazi. Ariko ngira mvuge ivyo kwerekwa no guhishurirwa n'Umwami wacu.

© 2007 Bible Society of Burundi.

2Ndazi umuntu wo muri Kristo, yaduganywe akajanwa mw'ijuru rya gatatu, ubu hashize imyaka icumi n'ine--namba yari mu mubiri sindabizi; canke namba atari mu mubiri sindabizi, bizi Imana.

3Kandi nzi yuko uwumeze atyo--namba yari mu mubiri, canke Namba atari mu mubiri, sindabizi, bizi Imana—

4yaduganywe, akajanwa muri Paradiso, akumva ibitovugwa, ivyo umuntu atemererwa kuvuga.

5Kubwo umuntu ameze atyo ndirata, ariko ku bwanje sinokwirata, atari intege nke zanje.

6Kandi nogomvye kwirata sinobaye ndi igipfu, kuko noba mvuga ukuri. Ariko nsizeho kugira ngo ntihagire uwunyiyumvira ibiruta ivyo ambonako canke ivyo anyumvako.

7Kandi kugira ngo sinterwe kwishira hejuru birenze urugero, ndabitewe n'uko nahishuriwe ibirushiriza kuba ibihambaye, ni co catumye mpabwa igisata mu mubiri, intumwa ya Satani yo kunkubita ibipfunsi, ngo sinterwe kwishira hejuru birenze urugero.

8Kandi kuri ivyo natakambiye Umwami wacu gatatu ngo kimvemwo.

9Arambarira ati: "Ubuntu bwanje buraguhagije; kuko ubushobozi bwanje buhingurirwa mu ntege nke." Nuko canecane nzonezezererwa kwirata intege nke zanje, ngo ubushobozi bwa Kristo bunzeko.

10Ni co gituma kubwa Kristo nzonezezererwa intege nke zanje, no gukubagurwa, n'imibabaro, no guhigwa, n'ivyago; kuko iyo mbaye umunyantege nke ari ho ndushiriza kugira ubushobozi.

11Mbaye igipfu, ni mwebwe mwabinteye, kuko ivyari bikwiye ari uko mba narashimagijwe namwe. Za ntumwa zihambaye cane nta co zindushije, naho ndi ubusa.

12Ni ukuri ivyerekana intumwa vyakorewe hagati yanyu mu kwihangana kwose, ni vyo bimenyetso n'ibitangaza n'ibikorwa bikomeye.

13Ayandi mashengero yabarushije iki, atari uko jewe ubwanje ntababereye ikirusha? Mumparire ico caha!

14Ehe niteguye kuza i wanyu ubugira gatatu; sinzoba nje kubaremereza ivyo mu mpa. Kuko atari ivyanyu ndondera ariko ni mwebwe ubwanyu ndondera; kuko abana badakwiye kuziganiriza abavyeyi, ariko abavyeyi ni bo bakwiye kuziganiriza abana.

15Ku bwanje nzonezezererwa cane gutanga ivyanje, no kwitanga rwose, nitangira ubugingo bwanyu. Mbega ko ndushiriza kubagirira urukundo, none urwo nkundwa rugabanuke?

© 2007 Bible Society of Burundi.

16Ivyo vyo birahaye; ubwanje sinabaremereye; ariko, ko naciye mu kandi kenge, ubuhinga ubugunge.

17Mbega mu bo nabatumyeko hari umuntu natumye kubaka inyungu?

18Nagishije inama Tito, ndamurungikana; na wa muvukanyi wundi. Hari inyungu Tito yabatse? Ntitwagendeye muri Mpwemu umwe? Ntiyageze ikirenge mu canje?

19Uhereye kera mwiyumvira yuko tubiregurako. Imbere y'Imana no muri Kristo ni ho tuvugira. Ariko yemwe abo nkunda, vyose tubivugiye kubakomeza.

20Kuko binteye akoba yuko, aho nzozira, kumbure nzosanga mumeze uko ntagomba, nanje muzosanga meze uko mutagomba; kandi yuko kumbure hazoba imitongano, ishari, ishavu, ikeba, ukuvuga abandi nabi, insaku, ukwihimbariza ubusa n'imivurungano;

21kandi yuko, aho nzozira, Imana yanje izosubira kuncisha bugufi muri mwebwe, nanje nkazoririra benshi bacumuye kera, ntibihane ivyonona, n'ubushakanyi, n'ivyo isoni nke bakoze.

## Korinto Rya Kabiri 13

1Ubu bugira bube ubwa gatatu nza i wanyu. Ijambo ryose rizoringanizwa bivuye mu kanwa k'ivyabona bibiri canke bitatu.

2Nabivuze nkiri kumwe namwe ubugira kabiri kera, na none ntari iyo ni ko ndabivuga bitaraba, ndabarira abacumuye kera n'abandi bose, yuko ni nagaruka ntazogira akagongwe;

3kuko murondera ikimenyetso co kwerekana yuko Kristo ari we amvugisha, umwe atari umunyantege nke kuri mwebwe, ariko agira ubushobozi hagati yanyu.

4Kuko intege nke zateye ko abambwa, ariko none ariho ku bwo ubushobozi bw'Imana. Natwe turi abanyantege nke muri we, ariko tuzobanaho na we, kubwo ubushobozi bw'Imana tubereyeho mwebwe.

5Ba ari mwebwe mwisuzuma, mumenye yuko muhagaze mu kwizera; ba ari mwebwe mwiraba. Mbega ntimwiyizi, ntimuzi yuko Yesu Kristo ari muri mwebwe? --kiretse ko mwoba muri abahinyuwe!

6Ariko nizigiye yuko muzomenya ko tweho tutari abahinyuwe.

7Kandi turasaba Imana ngo ntimugire ikibi mukora, si ukugira ngo tuboneke ko turi abemewe, ariko ni ukugira ngo mukore iciza, natwe tuboneke nk'abahinyuwe.

8Kuko tudashobora kurwanya ukuri, ariko duherereye mu ruhande rw'ukuri.

9Turanezerwa iyo tugize intege nke, namwe mukagira inkomezi; kandi ico dusaba ngiki, ni uko mutunganywa rwose.

© 2007 Bible Society of Burundi.

10Ni co gitumye ndabandikira ivyo tutari kumwe, kugira ngo ni twaba kumwe sinzohambare, nk'uko nahawe ububasha n'Umwami wacu bwo kwubaka, ariko si ubwo gusambura.

11Ibisigaye bavukanyi, muganuke; mutungane rwose, mwemere guhanurwa, muhuze imitima, mubane amahoro. Ni ho Imana nyene urukundo n'amahoro izobana namwe.

12Muramukanishe kugumbirana kwera.

13Abera bose barabaganutsa.

14Ubuntu bw'Umwami wacu Yesu Kristo, n'urukundo rw' Imana, n'ubumwe buva kuri Mpwemu Yera, bibane namwe mwese.

© 2007 Bible Society of Burundi.

# Galatiya

## Galatiya 1

1 Pahulo, intumwa itatumwe n'abantu, kandi nta muntu yabariwe kuntuma, ariko
natumwe na Yesu Kristo, n'Imana Data wa twese yamuzuye mu bapfuye,

2 mfatanije n'abavukanyi turi kumwe bose kubandikira, mwebwe abo mu mashengero
y'i Galatiya.

3 Ubuntu n'amahoro biva ku Mana Data wa twese no ku Mwami wacu Yesu Kristo
bibe muri mwebwe.

4 Uwo mwami Yesu Kristo yitangiye ivyaha vyacu, ngo aturokore muri iki gihe kibi
c'ubu, nk'uko Imana yacu yagomvye, ni yo Data we twese.

5 Icubahiro kibe icayo ibihe bitazoshira. Amina.

6 Natangajwe ni uko muriko murareka vuba mutyo Iyabahamagaye ku bwo ubuntu
bwa Kristo, mukemera ubutumwa bunyuranye n'ubwo,

7 kandi ata bundi buriho; ariko hariho abantu babahagarika imitima, bakagomba
guhindura ukundi ubutumwa bwa Kristo.

8 Ariko naho yoba ari twebwe canke umumarayika avuye mw'ijuru, ababarira
ubutumwa bunyuranye n'ubwo twababariye, arakavumwa.

9 Nk'uko twavuze ubwa mbere, n'ubu nongeye kubivuga ko ni hagira umuntu ababarira
ubutumwa bunyuranye n'ubwo mwemeye, arakavumwa.

10 Mbega ubu n'ishimwe ry' abantu ngomba, canke ni iryo Imana? Canke se ndondera
kunezereza abantu? Iyo mba nkinezereza abantu, simba ndi umushumba wa Kristo.

11 Ku vyo ubutumwa navuze, ndabamenyesha bavukanyi, yuko atari ubwo abantu.

12 Kuko nanje ntabuhawe n'umuntu, kandi sinabwigishijwe, ariko ni Yesu Kristo
yabumpishuriye.

13 Mwumvise ingeso zanje nari mfise kera, nkiri mw'idini y'Abayuda, ingene nahiga
ishengero ry'Imana birengereje, nkaritikiza.

14 Kandi mu bwoko bwacu narushije benshi bo mu bo twarukanye kuja imbere
mw'idini y'Abayuda, kuko nabarusha kugira ishaka ry'imigenzo twarazwe na ba
sogokuruza.

15 Ariko aho bihimbariye Imana yandobanuye nkiri mu nda ya mama, ikampamagara
ku bwo ubuntu bwayo,

16 guhishurira umutima wanje Umwana wayo, ngo mvuge ubutumwa bwiwe bwiza mu
banyamahanga. Ako kanya sinagishije inama abafise inyama n'amaraso,

17 kandi sinaduze i Yerusalemu ku bantanguriye kuba intumwa, ariko nagiye muri
Arabiya, kandi hanyuma nsubira i Damasiko.

© 2007 Bible Society of Burundi.

18Maze imyaka itatu ishize nduga i Yerusalemu kwibonanira na Kefa, mara i we imisi
icumi n'itanu.

19Ariko mu zindi ntumwa nta wundi nabonye, atari Yakobo, mwene nyina w'Umwami
Yesu.

20Ivyo ndabandikiye ni ukuri, ehe ndabivugiye imbere y'Imana, simbesha.

21Maze nja mu ntara z'i Siriya n'i Kilikiya.

22Abo mu mashengero y'i Yudaya yo muri Kristo ntibaribwambone.

23Ariko bumva gusa abamvuga bati: "Umwe yahora aduhiga mbere, ubu asigaye
yamamaza ivyizerwa yari yagerageje kuzimanganya.”

24Nuko bahimbaza Imana kubwanje.

## Galatiya 2

1Maze hahise imyaka icumi n'ine, nongera kudugana na Barunaba, kandi na Tito
ndamujana.

2Kandi naduzeyo ku bwo guhishurirwa, ndabashira imbere ubutumwa bwiza mvuga
mu banyamahanga, ariko ndabushira imbere y'abashimwa twiherereye, ngo sinirukire
ubusa, canke simbe narirukiye ubusa.

3Ariko na Tito twari kumwe naho yari Umugiriki ntibamugobereye guhimburwa
igikoba c'ubugabo.

4Kandi ari co coshimishije abigira abavukanyi banyegetejwe mw'ishengero, binjiye
mu mpisho ngo basume urusaku ukwidegemvya kwacu dufise muri Kristo Yesu,
kugira ngo badushire mu buja.

5Abo ntitwabumviye na gatoya ngo tuganzwe na bo; kugira ngo ukuri kw'ubutumwa
bwiza kugume muri mwebwe.

6Ariko abashimwa ko ari bakuru --uko bari bameze ubwa mbere sindabibabaye,
kubwanje vyose ni bimwe, Imana ntirobanura abantu ku cubahiro--abo bashimwa nta
co banyongerereje.

7Ariko babonye yuko najejwe ubutumwa bwo kwigisha abatahimbuwe igikoba
c'ubugabo, nk'uko Petero yajejwe ubwo kwigisha abahimbuwe igikoba c'ubugabo.

8Kuko Iyashoboje Petero gutumwa ku bahimbuwe igikoba c'ubugabo, ari yo
yanshoboje nanje gutumwa kubatari Abisirayeli.

9Yakobo, Kefa na Yohana, bashimwa ko ari inkingi, bamaze kumenya ubuntu
nahawe, baduha ukuboko twe na Barunaba, ngo dufatanye nabo; ngo twebwe tuje ku
batari Abisirayeli, na bo baje ku bahimbuwe igikoba c'ubugabo.

10Ariko ico bagomvye gusa n'uko twibuka aboro, ari co nyene nanje nari nsanzwe
mfitiye umwete.

© 2007 Bible Society of Burundi.

11Ariko Kefa aje muri Antiyokiya, namuharirije imbonankubone, kuko yari n'ibimutsindishije.

12Kuko imbere yuko abavuye kwa Yakobo bashikayo yasangira n'abanyamahanga; ariko bashitseyo, ariyonjorora, arabanena, kuko atinye abo mu bahimbuwe igikoba c'ubugabo.

13Kandi n'abandi Bayuda bahumbana na we, bitayeko na Barunaba atwarwa n'ubwo buhumvyi bwabo.

14Ariko ndabonye badaca mu nzira igororotse, nk'uko ukuri kw'ubutumwa bwiza kuri, mbaririra Kefa imbere ya bose nti: "Ko wewe witondera ingeso z'abanyamahanga, zitari izo Abayuda, kandi uri Umuyuda, ugobera ute abanyamahanga kuba nk'Abayuda?"

15Twebwe mu kameremere kacu turi Abayuda, ntituri abanyavyaha bo mu banyamahanga.

16Ariko tuzi yuko umuntu adatsindanishirizwa n'ibikorwa bishinzwe n'ivyagezwe, ariko atsindanishirizwa no kwizera Yesu Kristo. Natwe twizeye Kristo Yesu, ngo kwizera Kristo kube ari kwo kudutsindanishiriza, atari ibikorwa bishinzwe n'ivyagezwe; kuko ata muntu atsindanishirizwa n'ibikorwa bishinzwe n'ivyagezwe.

17Ariko namba twabonetse ko turi abanyavyaha, hamwe twarondera guhindurwa intungane no kuba muri Kristo, mbega Kristo ni umukozi agabura icaha? Eka na mba!

18Nokwongera kwubaka ivyo nasambuye noba niseruye ko ndi umuntu acumura.

19Ivyagezwe vyanteye gupfa ku vyagezwe, ngo mbeho ku Mana.

20Nabambanywe na Kristo, ariko ndiho; yamara si jewe nkiriho, ni Kristo ariho muri jewe. Ivyo nkora vyose nkiriho mu mubiri ndabikoreshwa no kwizera Umwana w'Imana yankunze, akanyigura.

21Simpindura ubusa ubuntu bw'Imana, kuko asangwa ukugororoka kuzanwa n'ivyagezwe, Kristo azoba yapfiriye ubusa.

## Galatiya 3

1Yemwe Bagalatiya b'ibijuju, ni nde yabaroze, kandi ari mwebwe mweretswe Yesu Kristo abambwe, mu maso yanyu?

2Iki conyene ni co ngomba ko mumbwira; mbega Mpwemu mwamuronkeshejwe n'ibikorwa vy'ivyagezwe, canke n'ukwumva gufatanije n'ukwizera?

3Mbega mwakabaye muri ibijuju mutyo? Mwatanguye mu vya Mpwemu, mbega none musozereye mu vyo umubiri?

4Mbega ayo yose mwayaboneye ubusa? Namba yari ayo ubusa koko!

5Iyibaha Mpwemu, igakorera ibitangaza muri mwebwe, mbega ibikoreshwa ni uko mukora ibikorwa vy'ivyagezwe, canke ni uko mwumvise mukizera?

© 2007 Bible Society of Burundi.

6 Ni nk'uko Aburahamu yizeye Imana, akabiharurwako nk'ukugororoka.

7 Mumenye rero yuko abishimiye ukwizera ari bo bana ba Aburahamu.

8 Kandi ivyanditswe vyabimenye bitaraba yuko Imana izotsindanishiriza abanyamahanga ku bwo ukwizera, bibarira Aburahamu ubutumwa bwiza bw'ibitaraba bati: "Muri wewe ni ho amahanga yose azoherwa umugisha.”

9 Nuko abishimira ukwizera bahabwa umugisha hamwe na Aburahamu yizera.

10 Abishimira ibikorwa vy'ivyagezwe bose bari n'umuvumo; kuko handitswe ngo azoba avumwe umuntu wese adashishikarira ivyanditswe vyose mu gitabo c'ivyagezwe, ngo avyitondere.

11 Biraseruka yuko ata muntu atsindanishirizwa n'ivyagezwe imbere y'Imana, kuko handitswe ngo Umugororotsi azobeshwaho n'ukwizera.

12 Ariko ivyagezwe ntibiva ku kwizera, yamara ngo Uwuzovyitondera ni vyo bizomubeshaho.

13 Kristo yaducunguye umuvumo w'ivyagezwe, yacitse ikivume kubwacu; kuko handitswe ngo azoba avumwe umuntu wese amanitswe ku giti: “

14 kugira ngo umugisha wa Aburahamu ushike ku banyamahanga, bawuheshejwe na Yesu Kristo, kugira ngo ukwizera kuturonkeshe Mpwemu twasezeraniwe.

15 Bavukanyi, ibi ndabivuga nk'imvugo y'abantu. Isezerano, naho ryoba iryo umuntu gusa, iyo rishinzwe nta muntu arikuraho canke aryongerako.

16 Nuko Aburahamu ni we yasezeraniwe amasezerano, bo n'uruvyaro rwiwe. Ntiyavuze iti: ""Imvyaro;"" nk'uwuvuga benshi; yamara yavuze nk'uwuvuga umwe iti: ""Ni uruvyaro rwawe; ni rwo Kristo.""“

17 Ariko ico mvuze; isezerano ryabanje gushingwa n'Imana, ivyagezwe vyaje hashize imyaka amajana ane na mirongo itatu, ntivyorikuraho ngo bihindure ubusa iryo sezerano.

18 Kuko iyo umwandu uzanwa n'ivyagezwe, woba utazanywe n'isezerano, ariko Imana yawuhaye Aburahamu, iwumusezeraniye. “

19 Nuko ivyagezwe ni ivyo iki? Vyageretsweko kubwo ibicumuro, ngo bigumeho kugeza aho uruvyaro rwasezeranywe ivyo isezerano ruzozira. Kandi vyahawe abamarayika kubigera, na bo babiha umushikirwa w'amajambo.

20 Ariko umuhuza ntahuza umuntu umwe, yamara Imana ni imwe.

21 Mbega ivyagezwe birwanya amasezerano y'Imana? Eka na mba! Iyo haba hariho ivyagezwe vyashinzwe bishobora kubeshaho abantu, ni ukuri ukugororoka kuba kwarazanywe n'ivyagezwe.

22 Ariko ivyanditswe bivuga yuko vyose vyugaranywe ngo biganzwe n'icaha, kugira ngo abizera bahabwe ivyasezeranywe biheshwa no kwizera Yesu Kristo.

© 2007 Bible Society of Burundi.

23Ariko ukwizera kutaraza, twarindwa n'ivyagezwe, twugaranywe turindiriye ukwizera kwagira guhishirwe.

24Uko ni ko ivyagezwe vyatubereye umurezi aturera akadushikiriza Kristo, ngo dutsindanishirizwe n'ukwizera.

25Ariko ukwizera ko kwaje, ntitukirerwa n'umurezi.

26Mwese muri abana b'Imana kubwo kwizera Kristo Yesu.

27Kuko mwese ababatirijwe kuba aba Kristo mwambaye Kristo.

28Ntihashobora kuba Umuyuda canke Umugiriki, ntihashobora kuba umuja canke uwidegemvya, ntihashobora kuba umugabo canke umugore; kuko mwese muri umwe muri Kristo Yesu.

29Ko muri aba Kristo, muri uruvyaro rwa Aburahamu, muri basamuragwa nk'uko vyasezeranywe.

## Galatiya 4

1Ariko ndavuga yuko samuragwa, iyo akiri umwana, ata co atandukanako n'umushumba, naho ari we nyene ibintu vyose.

2Ariko aganzwa n'abamuzigama n'ababwiriza kugeza mu gihe cashinzwe na se.

3Natwe ni uko; tukiri abana twari tujakariye ivya mbere vyo mw'isi.

4Maze igihe gikwiye gishitse, Imana ituma Umwana wayo, yavyawe n'umugore, kandi yavutse aganzwa n'ivyagezwe,

5ngo acungure abaganzwa n'ivyagezwe, biduheshe gucika abana bayo.

6Kandi kuko mu bana bayo, Imana yatumye Mpwemu w'Umwana wayo mu mitima yacu, atakamba ati: "Abba, Data.”

7Ni co gituma utakiri umushumba, ariko uri umwana wayo; kandi ko uri umwana wayo, uri umuragwa, ubihawe n'Imana.

8Ariko ico gihe, kuko mutari muzi Imana, mwari mujakariye imana zitari zo uhereye mu kameremere kazo.

9Ariko none, ko mwamenye Imana, canecane ko mwamenywe na yo, ni igiki catumye musubira inyuma mugahindukirira ivya mbere vya goyigoyi, bitagira ikimazi, mukagomba kubijakarira ukundi gusha?

10Muziririza imisi, amezi, ibihe n'imyaka.

11Munteye akoba, yuko kumbure ivyo nabakoreye natamijwe n'ubusa.

12Ndabinginze, bavukanyi, mumere nkanje, kuko nanje meze nkamwe. Nta nabi mwangiriye,

© 2007 Bible Society of Burundi.

13ariko murazi yuko amagara make y'umubiri ari yo yatumye ndababarira ubutumwa bwiza ubwa mbere.

14Kandi ivyabagerageza kubwo umubiri wanje ntimwabitituye, ntimwaciriye inyeri, ariko mwanyakiriye nk'umumarayika w'Imana, canke nka Kristo Yesu.

15None kwa kwishima kwanyu kuri hehe? Ndi icabona canyu yuko iyo biba vyarashobotse, muba mwaremeye kwinogora amaso, mukayampa.

16Mbega mpinduwe umwansi wanyu no kubabwira ukuri?

17Ba bandi babagirira ishaka mu buryo butari bwiza; ariko ico bagomba ni ukubazigira hanze, kugira ngo namwe mubagirire ishaka.

18Mugabo, ni vyiza kugirira ivyiza ishaka ibihe vyose, atari igihe turi kumwe gusa,

19bana banje bato, abo nongera kwibaruka mu marira, gushitsa aho ishusho ya Kristo izoremerwa muri mwebwe.

20Kandi nagomba gushikirana namwe aka kanya, no kworosha ijwi, kuko ivyanyu binzazaniye.

21Mwebwe abagomba kuganzwa n'ivyagezwe, ni mumbarire. Mbega ntimwumva ivyagezwe?

22Kuko vyanditswe yuko Aburahamu yarafise abahungu babiri, umwe ari uwo ku ncoreke, uwundi ari uwo ku mugore bwite.

23Uwo ku ncoreke yavyawe mu buryo bw'umubiri; uwo ku mugore bwite yavyawe kubwo isezerano.

24Ivyo ni nk'umugani. Kuko abo bagore ari nk'amasezerano abiri, rimwe ryavuye ku musozi Sinayi, rivyara abo kuguma mu buja, iryo ni Hagari.

25Nuko Hagari ni umusozi Sinayi wo muri Arabiya, usobanurwa ngo Yerusalemu wa none, kuko usangiye ubuja n'abana bawo.

26Ariko Yerusalemu wo hejuru ni wo mugore bwite, ni wo mama wa twese.

27Kuko handitswe, ngo Nezerwa, yewe mugore w'ingumba utavyara, Turika, usemerere, wewe utaramukwa, Kuko abana b'intabwa ari benshi, baruta abo uwufise umugabo.

28Namwe bavukanyi, muri abana b'isezerano, nk'uko Isaka yari ari.

29Ariko nk'uko ico gihe uwavyawe mu buryo bw'umubiri yahama uwavyawe mu buryo bwa Mpwemu, na none ni ko biri.

30Ivyanditswe bivuga biti: "Irukana incoreke n'umwana wayo, kuko umwana w'incoreke atazoraganwa n'umwana w'umugore bwite.”

31Nuko bavukanyi, ntituri abana b'incoreke, turi aba wa mugore bwite.

© 2007 Bible Society of Burundi.

# Galatiya 5

1Kristo yatugobotoye ngo tube mu mwidegemvyo. Nuko muhagarare mushikamye,
ntimukongere kuzingirwa n'ugutwazwa ituntu n'ubuja.

2Umve, jewe Pahulo ndababwira yuko ni mwahimburwa igikoba c'ubugabo, Kristo
ata co azobamarira.

3Kandi ndabarira umuntu wese ahimburwa igikoba c'ubugabo, ndabishingiye intahe,
yuko ari n'umwenda wo kwitondera ivyagezwe vyose.

4Yemwe abagomba guhindurwa intungane n'ivyagezwe, erega muhinduye ubusa
gufatana kwanyu na Kristo, muratemvye muretse ubuntu bw'Imana.

5Kuko twebwe, mu buryo bwa Mpwemu, twiteze ivyizigiro vy'ukugororoka, kubwo
ukwizera.

6Kuko muri Kristo Yesu, ari uguhimbura igikoba c'ubugabo, ari ukudahimburwa
igikoba c'ubugabo, bitagira ikimazi; ikigira ikimazi ni ukwizera gukoreshwa
n'urukundo.

7Ko mwagenda neza; ni nde yabateye gutezura ngo ntimwumvire ukuri?

8Iyo nyosha ntiyavuye kuri uwo abahamagara.

9Umwambiro muke ututumbisha irobe ryose.

10Ndabizigiye ku bwo Umwami wacu yuko mutazogira uwundi mutima; ariko
uwubahagarika imitima, uwo ari we wese, urubanza ruzomusubirako.

11Ariko jewe, bavukanyi, namba nkibarira abantu guhimburwa igikoba c'ubugabo, ni
igiki gituma ngihamwa? Igitsitaza c'umusaraba kiba carahindutse ubusa.

12Icompa ababavurunga bakikona rwose.

13Bavukanyi, mwahamagariwe umwidegemvyo; mugabo rero, uwo mwidegemvyo
ntimuwugire urwitwazo rw'akameremere kanyu, ariko urukundo rubatere gukorerana.

14Kuko ivyagezwe vyose bihurira muri iri jambo, ngo mukunde ababanyi banyu
nk'uko mwikunda.

15Ariko ni mwashikurana, mugatabagurana, mwirinde ntimuhezanye.

16Ndavuga nti: "Mugendeshwe na Mpwemu, ni ho mutazoshitsa ivyo akameremere
kanyu kifuza.”

17Kuko akameremere kifuza ivyo Mpwemu yanka, kandi Mpwemu yifuza ivyo
akameremere kanka. Kuko ivyo bihiganwa, ngo ntimukore ivyo mugomba.

18Ariko namba murongorwa na Mpwemu, ntimuganzwa n'ivyagezwe.

19Kandi ibikorwa vy'akameremere kacu biramenyekana, n'ibi: ubusambanyi,
ibihumanya, ivyo isoni nke,

© 2007 Bible Society of Burundi.

20gusenga ibigirwamana, uburozi, ubwansi, intonganya, ishari, ishavu, ikeba, kwitandukanya, ibice,

21igono, kuborerwa, kudandahirwa, n'ibindi bene ivyo. Ivyo ndabibaburiye, nk'uko nabibaburiye kera, yuko abakora ibisa bityo batazoragwa ubwami bw' Imana.

22Ariko ivyo Mpwemu yama ni: urukundo, umunezero, amahoro, ukwihangana, kugira neza, ingeso nziza, kuba umwizigirwa,

23ubugwaneza, ukwirinda. Ibimeze bityo nta vyagezwe bibibuza.

24Kandi aba Kristo Yesu babambanye akameremere kabo n'ivyo gahahamiye n'ivyo kifuza.

25Namba tubeshwaho na Mpwemu, tuyoborwe na Mpwemu.

26Ntitwifate uko tutari, ngo twandurutsanye, tugiriranire ishari

## Galatiya 6

1Bavukanyi, umuntu n'iyo yobonekako icaha, mwebwe abo impwemu mutunganye uwumeze atyo, mumuhanurishe umutima w'ubugwaneza. Kandi wiyubare ubwawe, nawe nyene ntiwoshwe nabi.

2Mwakirane imitwaro, mushikane mutyo ivyagezwe na Kristo.

3Umuntu ni yiyumvira ko ari agakomeye, kandi ata co amaze, aribesha.

4Ariko umuntu wese asuzume igikorwa ciwe, ni ho azobona ico yirata ku mutumba wiwe bwite, atari kubwo uwundi.

5Kuko umuntu wese azokwiyikorerera uwiwe mutwaro.

6Ariko uwigishwa ijambo ry'Imana ahe umwigisha mu vyiza vyose.

7Ntimuzimire, Imana yo nticokorwa; kuko ico umuntu abiba cose ari co azokwimbura.

8Uwubiba mu buryo bw'umubiri azokwimbura ukubora mu mubiri; ariko uwubiba muri Mpwemu azokwimbura muri Mpwemu ubugingo budashira.

9Twame dukora ivyiza, ntiducobogore, kuko igihe ni cashika tuzokwimbura, ni tutarambirwa.

10Nuko rero, iyo turonse uburyo, tugirire bose neza, canecane abo inzu y'abizera.

11Murabe ingene ndabandikishirije ukuboko kwanje inyuguti nininini.

12Abagomba bose kwiha igikundiro ku vyo umubiri ni bo babagobera guhimburwa igikoba c'ubugabo; nta yindi nyanduruko, ni ukugira ngo ntibahamwe bahorwa umusaraba wa Kristo.

13Kuko abahimbuwe igikoba c'ubugabo na bo nyene batitondera ivyagezwe, ariko bashaka ko muhimburwa igikoba c'ubugabo, ngo birate imibiri yanyu.

© 2007 Bible Society of Burundi.

14Ariko jeho sinkirate ikindi, atari umusaraba w'Umwami wacu Yesu Kristo, watumye isi imbera ikibambwe, nanje isi nkayibera ikibambwe.

15Kuko guhimburwa igikoba c'ubugabo ata kimazi, no kudahimburwa igikoba c'ubugabo nta kimazi, ikigira ikimazi ni icaremwe gishasha.

16Abazogendera kuri urwo rugezo, amahoro abe muri bo n'ikigongwe, no mu Bisirayeli b' Imana.

17Uhereye ubu ntihakagire umuntu angora, kuko mfise ku mubiri inkovu za Yesu.

18Bavukanyi, ubuntu bw' Umwami wacu Yesu Kristo bubane n'imitima yanyu. Amina.

© 2007 Bible Society of Burundi.

## Abanyefeso 1

1 Pahulo, nagizwe intumwa ya Kristo Yesu ni uko Imana yabigomvye, ndabandikiye abera bari muri Efeso, b'abizigirwa bo muri Kristo Yesu.

2 Ubuntu bubabemwo n'amahoro, biva ku Mana Data wa twese no ku Mwami Yesu Kristo.

3 Imana y'Umwami wacu Yesu Kristo, ari yo Se, iragahezagirwa, yaduhezagiriye imihezagiro yose y'impwemu ahantu ho mw'ijuru muri Kristo.

4 Nk'uko yadutoranirije muri we, itanguriro ry'isi ritarashirwaho, kugira ngo tube abera tutagira agasembwa imbere yayo, turi mu rukundo.

5 Kuko yagabiye kera ko duheshwa na Yesu Kristo gucika abana bayo kubwayo, nk'uko yabigomvye bikayihimbara.

6 Kugira ngo ubwiza bw'ubuntu bwayo yatugabiriye mu wo ikunda bushimwe.

7 Muri we ni ho duherwa gucungurwa n'amaraso yiwe, ni kwo guharirwa ibicumuro vyacu, nk'uko itunga ry'ubuntu bwayo riri.

8 Yabudusesekarijemwo mu bwenge bwose no kumenya;

9 itwatiye ibanga ry'ivyo igomba, nk'uko vyayihimbaye, ivyigiriye imigabo kuva kera muri we,

10 vy'ingene izogenza vyose, igihe gikwiye gishitse, gukoraniriza vyose muri Kristo, ibiri mw'ijuru n'ibiri mw'isi.

11 Kuba muri uwo kwaduhesheje gucika ihanga ryayo, twashiriweho kera nk'uko Iyo yabigabiye, ikora vyose nk'uko imigabo yo mu mutima wayo iri;

12 kuzoba abo guhesha icubahiro ubwiza bwayo, twebwe abizigiye Kristo kera.

13 Muri we namwe mumaze kwumva ijambo ry'ukuri, ni ryo butumwa bwiza bw'agakiza kanyu, mumaze no kumwizera, ni ho mwashiriweko ikimenyetso, ni co Mpwemu Yera yasezeranywe.

14 Ni we ngwati y'umwandu tuzohabwa, kugira ngo abo Imana yaronse ibacungure, ngo ubwiza bwayo bushimwe.

15 Ni co gituma nanje, numvise ukwizera Umwami Yesu kuri muri mwebwe, n'urukundo mukunda abera bose,

16 ntahengeshanya kubashimira Imana, ndabahoza mu kanwa uko nsenze,

17 ngo Imana y'Umwami wacu Yesu Kristo, Data wa twese w'ubwiza, ibahe umutima w'ubwenge no guhishurirwa mu kuyimenya;

© 2007 Bible Society of Burundi.

18ngo amaso y'imitima yanyu yihweze, kugira ngo mumenye ivyo mwizigizwa n'uguhamagara kwayo ivyo ari vyo, mumenye n'itunga ry'ubwiza bw'umugabane ufise mu bera.

19Mumenye n'ubwinshi buhebuje bw'ubushobozi bwayo ikoreshereza muri twebwe abizera, nk'uko kwa gukora kw'ububasha bw'ubushobozi bwayo kungana,

20ukwo yakoreye muri Kristo, hamwe yamuzura mu bapfuye, ikamuvyagiza i buryo bwayo ahantu ho mw'ijuru,

21imushize hejuru cane y'ubukuru bwose, ububasha bwose, ubushobozi bwose, ubwami bwose n'izina ryose rivugwa, si muri iki gihe gusa, ariko no mu kizoza.

22Kandi yamushikirije vyose, ibishira musi y'ibirenge vyiwe, kandi imuha ishengero ngo abe umutwe waryo wo gusumba vyose,

23ni ryo mubiri wiwe w'ubwuzure, bwuzuza vyose vy'ahantu hose.

## Abanyefeso 2

1Namwe yarabagize bazima, hamwe mwari mupfuye mwishwe n'ibigabitanyo n'ivyaha vyanyu,

2ivyo mwagenderamwo kera, nk'uko ivyo iyi si bigenda, mwumvira umwami w'abaganza ikirere, ni we mpwemu ikorera mu bantu b'intabarirwa.

3Kandi natwe twese twahora muri bo kera mu kwifuza kw'imibiri yacu, tugakora ivyo imibiri n'imitima vyacu bigomba, kandi mu kameremere kacu twari abo kurakirwa, nk'abandi bose.

4Ariko Imana, kuko ari umutunzi w'ikigongwe, kubwo urukundo rwayo rwinshi yadukunze,

5hamwe twari tugipfuye, twishwe n'ibicumuro vyacu, yatugiranye bazima na Kristo--ubuntu ni bwo bwabakijije—

6yatuzuranye na we, itwicarikana na we ahantu ho mw'ijuru, turi muri Kristo Yesu,

7kugira ngo mu bihe bizoza izokwerekane itunga rihebuje ry'ubuntu bwayo mu kutugirira neza muri Kristo Yesu.

8Ubuntu ni bwo bwabakijije kubwo ukwizera; na vyo nyene ntivyavuye kuri mwebwe, ni ingabire y'Imana;

9ntivyavuye ku bikorwa, kugira ngo ntihagire n'umwe yishimagiza.

10Kuko turi ibiremwa vyayo, twaremewe muri Kristo Yesu ngo dukore ibikorwa vyiza, ivyo Imana yateguye kera ngo tubigenderemwo.

11Nuko mwibuke yuko ubwa mbere, mwebwe abanyamahanga ku rukoba, mwebwe mucitwa abatahimbuwe igikoba c'ubugabo n'abo bitwa abahimbuwe igikoba c'ubugabo n'intoke ku mubiri,

© 2007 Bible Society of Burundi.

12ko ico gihe mwari mutandukanye na Kristo, muri n'itandukaniro n'ihanga rya Isirayeli, atasano mufitaniye n'amasezerano y'ivyasezeranywe, ata co mwizigiye ku bizoba, mwari mw'isi mutagira Imana Rurema.

13Ariko noneho, kuko muri muri Kristo Yesu, mwebwe abari kure kera mwigijwe hafi n'amaraso ya Kristo.

14Ni we mahoro yacu, kuko yahinduye ya macakubiri kuba kimwe, ahomvoye ca gisika co hagati cadutandukanya,

15ubwansi amaze kubuhinduza ubusa umubiri wiwe, ni bwo vya vyagezwe birimwo amabwirizwa ava mu vyashinzwe; kugira ngo muri we ya macakubiri ayaremwemwo umuntu umwe musha, ngo azane amahoro atyo;

16kandi ngo ayo macakubiri, amaze kuyagira umubiri umwe, ayuzurishe n'Imana umusaraba, awicishije bwa bwansi.

17Yaraje, ababwira ubutumwa bwiza bw'amahoro, mwebwe abari kure. Kandi abari hafi na bo ababwira amahoro.

18Kuko, uko twari amoko abiri, ubu ni we adushikiriza Data wa twese, turi muri Mpwemu umwe.

19Nuko ntimukiri abashitsi n'abanyamahanga, ariko musangiye ubwoko n'abera, muri abo mu ngoro y'Imana;

20kuko mwubatswe ku mabuye y'umushinge, ari yo ntumwa n'abavugishwa n'Imana, Kristo Yesu ari we buye rigumya imfuruka.

21Muri we ingoro yose, yubatswe neza, irakura, ngo ibe urusengero rwera mu Mwami wacu.

22Muri we namwe murubakanwa, kugira ngo muheshwe na Mpwemu kuba ingoro Imana ibamwo.

## Abanyefeso 3

1Ni co gituma jewe Pahulo, imbohe ya Kristo Yesu, mbohewe mwebwe abanyamahanga,

2namba mwarumvise ububwiriza bwa bwa buntu bw'Imana nahawe kubagaburira;

3yuko mu guhishurirwa natiwe ibanga, nk'uko nabanje kwandika mu majambo make,

4namwe, ni mwayasoma, muzoshobora kubona ingene nzi ibanga rya Kristo.

5Ivyo, abana b'abantu ntibabimenyeshejwe mu bindi bihe, nk'uko muri iki gihe intumwa ziwe zera n'abavugishwa na we babihishuriwe na Mpwemu;

6yuko abanyamahanga basangiye natwe iragi, basangiye natwe umubiri umwe, basangiye natwe ivyasezeranywe muri Kristo Yesu kubwo ubutumwa bwiza.

© 2007 Bible Society of Burundi.

7Nacitse umukozi wabwo, nk'uko ingabire y'ubuntu bw'Imana iri, nabuhawe, nk'uko ubushobozi bwayo bukora.

8Jewe, uwuri mu nyuma y'uwo mu nyuma y'abera bose. Naherewe ubwo buntu kubwira abanyamahanga ubutumwa bwiza bw'itunga rya Kristo ritagira aho riherera,

9no guserurira bose ububwiriza bw'ibanga ubwo ari bwo. Ryari rihishijwe, uhereye kera hose, mu Mana Umuremyi wa vyose;

10kugira ngo noneho abakuru n'abafise ububasha b'ahantu ho mw'ijuru bamenyere kw'ishengero ubwenge bw'Imana bw'uburyo bwinshi.

11Nk'uko imigabo yayo iri, iyo yagabiye uhereye kera hose muri Kristo Yesu Umwami wacu.

12Muri we ni ho duherwa ubushizi bw'ubwoba no gushikira Imana tuyizigiye, kubwo kumwizera.

13Ni co gituma ndabinginga ngo ntimwihebuzwe n'amarushwa yanje yo kubwanyu, kuko ari yo cubahiro canyu.

14Ni co gituma mpfukamira Data wa twese,

15uwo imiryango yose yo mw'ijuru n'iyo mw'isi yitirirwa,

16ngo abahe, nk'uko itunga ry'ubwiza bwiwe riri, kuremeshwa n'ubushobozi imbere mu mitima mubihawe na Mpwemu wiwe.

17Kristo abe mu mitima yanyu kubwo ukwizera; kugira ngo mugize imizi ishinzwe mu rukundo, n'amabuye y'umushinge arwubatswemwo,

18mugire inkomezi zibashoboza gutahurira hamwe n'abera bose uburebure bw'ubwaguke, ubwo amakika, ubwo amaja ruguru n'ubwo amajepfo ubwo ari bwo,

19mumenye urukundo rwa Kristo ruruta uko rwomenywa; ngo mubone kwuzuzwa mushitse ku kwuzura kw'Imana kwose.

20Nuko Iyishobora gukora ibirengeye cane ivyo dusaba n'ivyo twiyumvira vyose, nk'uko ubushobozi bwayo budukoreramwo buri,

21icubahiro kibe icayo mw'ishengero no muri Kristo Yesu, kugeza ku buzukuruza bose b'ibihe bitazoshira. Amina.

## Abanyefeso 4

1Ni co gitumye ndabinginga, jewe imbohe y'Umwami wacu, ngo mugende uko bibereye ihamagarwa mwahamagawe,

2mwiyoroheje rwose, mufise ubugwaneza, mwihangana, mubabariranira muri mu rukundo.

3Mushishikaye kuzigamisha ubumwe buva kuri Mpwemu umugozi w'amahoro.

© 2007 Bible Society of Burundi.

4Hariho umubiri umwe, na Mpwemu umwe, nk'uko kandi mwahamagariwe icizigiro kimwe c'ihamagarwa ryanyu.

5Hariho Umwami umwe, ukwizera kumwe no kubatizwa kumwe.

6Hariho n'Imana imwe, ni yo Data wa twese, asumba bose, akoresha bose, ari muri bose.

7Ariko umuntu wese muri twebwe yahawe ubuntu, nk'uko tugererwa ingabire ya Kristo.

8Ni co gituma ivuga iti: "Yaraduze, aja iyo hejuru, ajanye iminyago, Agabira abantu ingabire."

9Ariko iryo jambo ngo Yaraduze, ni ukuvuga iki? Mbega ntiryerekana yuko yabanje kumanuka i kuzimu?

10Uwo yamanutse ni we yaduze, aja hejuru y'amajuru yose, kugira ngo anengesere vyose.

11Kandi yahaye bamwe kuba intumwa, abandi kuba abavugishwa na we, abandi kuvuga ubutumwa bwiza, abandi kuba abungere n'abigisha,

12kugira ngo abera babone gutungana, baheze bakore igikorwa co kugabura ivyo Imana, bubake umubiri wa Kristo;

13kugeza aho twese tuzoshikira ku kugiriranira ubumwe buva ku kwizera n'ukumenya Umwana w'Imana, kandi kugeza aho tuzoshikira kuba abantu bakuze, no ku rugezo rw'ubwinshi bw'ukunengesera kwa Kristo;

14kugira ngo dushire ubwana, ntituzungazungishwe n'imipfunda, ngo tujanwe irya n'ino n'imiyaga yose y'inyigisho n'ububeshi bw'abantu, n'ubugunge bwabo, n'uburyo bwinshi bwo kutuzimiza.

15Ariko tube imvugakuri turi mu rukundo, dukurire muri we muri vyose, ari we mutwe, ni wo Kristo.

16Umubiri wiwe wose, uteranijwe neza, ufatanijwe n'ibifashisho vy'ingingo zawo zose, nk'uko igice cose gikora ibango cagerewe, kuri we ni ho uronka gukura kwawo, ukubakwa mu rukundo.

17Ni co gituma mvuga ibi, nkabishingira intahe mu Mwami wacu, ngo ntimube mukigenda nk'uko abanyavyaha bagenda, bagendera mu bitagira ikimazi vyo mu bwenge bwabo.

18Ivyiyumviro vyabo biri mu mwiza, batandukanijwe n'ubugingo buva ku Mana kubwo ukutamenya kuri muri bo, n'ukudadarara kw'imitima yabo.

19Kandi babaye ibitimbe, bishira mu ngeso z'isoni nke, gukora ibihumanya vy'uburyo bwose bifatanije n'ukwifuza.

20Ariko mweho ntimwize Kristo mutyo,

© 2007 Bible Society of Burundi.

21namba mwaramwumvise, mukigishirizwa muri we nk'uko ukuri kwo muri Yesu kuri,

22kubabwira ku vyo ingeso zanyu za kera ngo mwiyambure wa muntu wa kera, abozwa n'ukwifuza kw'uruhendo;

23mugahinduka bashasha mu mpwemu y'ubwenge bwanyu,

24mukambara wa muntu mushasha, yaremwe mw'ishusho y'Imana mu kugororoka no mu kwera kw'ukuri.

25Maze mwiyambuye ibinyoma, umuntu wese avugane ivyo ukuri n'umubanyi wiwe, kuko turi ingingo z'abandi.

26Ni mwaraka ntibibakoreshe icaha. Izuba ntirirenge mukiratse,

27kandi ntimuhe wa mugarariji icicaro.

28Uwiba ntakongere kwiba, ariko apfume acumukura, akoreshe ayiwe maboko ivyiza, kugira ngo aronke ivyo gufasha uwukenye.

29Ntihazogire ibiyago bibi biva mu kanwa kanyu, ariko muvuge ijambo ryiza ryose ryo gukuza uwukwiye kuribwirwa, kugira ngo riheshe abaryumvise ubuntu bw'Imana.

30Kandi ntimukababaze Mpwemu w'Imana, yabashiriweko kuba ikimenyetso, gushitsa ku musi wo gucungurwa.

31Umururazi wose ukujingitwa, ishavu, gutongana n'ugutukana bibavemwo, hamwe n'inzigo yose.

32Mugiriranire neza, mugiriranire imbabazi, muharirane, nk'uko Imana na yo yabahariye muri Kristo.

## Abanyefeso 5

1Nuko mwigane Imana, nk' abana ikunda.

2Kandi mugendere mu rukundo, nk'uko Kristo na we yabakunze, akatwigura, akatubera ishikanwa n'ikimazi bihabwa Imana, umubabwe umota neza.

3Ariko ubusambanyi n'ibihumanya vyose canke ukwifuza ntimukabishire no mu kanwa, mube nk'uko bibereye abera.

4Ibiteye isoni canke amajambo y'ubupfu canke ibitwenza bibi ntibikumvikane muri mwebwe kuko ivyo bitabereye; ikibereye ni ugushima Imana.

5Kuko ibi mubizi neza, yuko ata mushakanyi, canke igihumane, canke uwifuza (ni we asenga ibigirwamana), azogira ico aragwa mu bwami bwa Kristo n'Imana.

6Ntihakagire umuntu abahendesha amajambo y'ubusa; kuko ivyo ari vyo bizanira ishavu ry'Imana abantu b'intabarirwa.

7Nuko ntimugafatanye na bo;

© 2007 Bible Society of Burundi.

8kuko kera mwari umwiza, none mukaba muri umuco mu Mwami wacu. Mugende nk'abana b'umuco,

9kuko imbuto y'umuco iboneka mu ngeso nziza zose no mu kugororoka no mu kuri.

10Mumenye neza ibihimbara Umwami wacu.

11Kandi ntimugafatanye n'ibikorwa vy'imburakimazi vy'umwiza, ariko canecane mubiserure,

12kuko ibikorwa na bo mu mpisho biteye isoni no kubivuga.

13Ariko vyose, iyo bishizwe ahabona, bigaragazwa n'umuco, kuko ikigaragazwa cose kiri mu muco.

14Ni co gituma bivugwa, ngo ikangure, wewe usinziriye, uzuke uve mu bapfuye, Kristo arakumurikira.

15Nuko mwirinde cane uburyo mugenda, ntimugende nk'imburabwenge, ariko mugende nk' abanyabwenge.

16Akaryo muronse, mugakoresha neza, kuko imisi ari mibi.

17Nuko ntimube ibipfu, ariko mutahure ivyo Umwami wacu agomba ivyo ari vyo.

18Kandi ntimukaborerwe umuvinyu, urimwo ubuhumbu; ariko mwuzure Mpwemu.

19Mubwirane zaburi, indirimbo n'amatazirano y'ivya Mpwemu, muririmba, mucurarangira Umwami wacu mu mitima yanyu.

20Imana, Data wa twese, muyishimire vyose imisi yose, mw'izina ry'Umwami wacu Yesu Kristo.

21Mugamburukanire, kuko mwubashe Kristo.

22Bagore, mugamburukire abagabo banyu, nk'uko mugamburukira Umwami wacu.

23Kuko umugabo ari we mutwe w'umugore wiwe, nk'uko Kristo na we ari umutwe w'ishengero, akaba Umukiza waryo, ari wo mubiri wiwe.

24Ariko nk'uko ishengero rigamburukira Kristo, kube ari ko abagore bagamburukira abagabo babo muri vyose.

25Bagabo, mukunde abagore banyu, nk'uko Kristo na we yakunze ishengero, akaryigura,

26ngo aryeze, aryogesheje amazi n'ijambo,

27maze ngo arirengukane imbere yiwe, ari ishengero rifise ubwiza, ridafise amarabaga canke agatotsi canke ikintu cose gisa gityo, ariko ngo ribe iryera ridafise agasembwa.

28Ni ko abagabo na bo bakwiye gukunda abagore babo nk'imibiri yabo bwite. Uwukunda umugore wiwe, aba yikunda,

© 2007 Bible Society of Burundi.

29kuko ata muntu yigeze kwanka umubiri wiwe, ariko arawugaburira, akawubungabunga, nk'uko Kristo na we agirira ishengero.

30Kuko turi ingingo z'umubiri wiwe.

31Ni co gituma umuntu azosiga se na nyina, akabana n'umugore wiwe ubutakivana, bompi bakaba umubiri umwe.

32Iryo banga rirahambaye, ariko ryerekeye kuri Kristo n'ishengero.

33Ariko namwe nyene, umuntu wese akunde umugore wiwe nk'uko yikunda; umugore na we ni yubahe umugabo wiwe.

## Abanyefeso 6

1Bana, mwumvire abavyeyi banyu mu Mwami wacu. Kuko ivyo ari vyo bigororotse.

2Wubahe so na nyoko; ico ni co cagezwe ca mbere kirimwo isezerano,

3kugira ngo uronke amahoro, urambire kw'isi.

4Namwe ba se, ntimukaratse abana banyu, ariko mubarere, mubahana mubahanura, uko Umwami wacu agomba.

5Bashumba, mwumvire ba shobuja bo ku mubiri, nk'uko mwumvira Kristo, mububashe muhinda agashitsi, mutagira ubupfunya mu mitima yanyu.

6Ntimubakorere bakibahagarikiye, nk' abanezereza abantu, ariko mubakorere nk'abashumba ba Kristo, mukora ivyo Imana igomba bivuye ku mutima.

7Mubakorere n'umutima ubikunze, nk'abakorera Shobuja mukuru, ntimube nk'abakorera abantu.

8Kuko muzi yuko umuntu wese iyo akoze iciza, azocishurwa na Shebuja mukuru, n'iyo yoba umushumba canke uwidegemvya.

9Namwe ba shebuja, mubagirire mutyo nyene, mwirinde kubakangisha, kuko muzi yuko Shobuja musangiye ari mw'ijuru, kandi ntarobanura abantu ku butoni.

10Ibisigaye, muremesherezwe mu Mwami wacu, no mu bushobozi bwiwe bwinshi.

11Mwambare ibirwanisho vyose vy'Imana, kugira ngo mushobore guhagarara mudatsinzwe n'ubugunge bwa wa mugarariji.

12Kuko abo tunigana atari abo inyama n'amaraso, ariko tunigana n'abakuru n'abafise ububasha n'abaganza iyi si y'umwiza, n'impwemu mbi z'ahantu ho mw'ijuru.

13Kubwo ivyo mwakire ibirwanisho vyose vy'Imana, kugira ngo mushobore kudatsindwa ku musi mubi, kandi ni mwaheza vyose mugahagarara mushikamye.

14Nuko rero mushikame, mukenyeje ukuri, mwambaye ukugororoka nk'inkinzo y'icuma ikingira igikiriza.

15Mwambaye ibirato ari ivyo mwete w'ubutumwa bwiza bw'amahoro.

© 2007 Bible Society of Burundi.

16Kandi hamwe n'ivyo vyose mwakire inkinzo y'ukwizera, ni yo muzoshoboza kuzimisha imyampi ya wa Mubi yose yaka umuriro.

17Mwakire inkofero y'agakiza, bo n'inkota ya Mpwemu, ni yo jambo ry'Imana.

18Musengere muri Mpwemu ibihe vyose, mu buryo bwose bwo gusenga no kwinginga, kandi ivyo mubibere maso, mukobeje rwose, musengera abera bose.

19Kandi nanje nyene munsengere, kugira ngo mpabwe insiguro uko mvuze kwose, namamaze nshirutse amazinda ibanga ry'ubutumwa bwiza,

20kuko ndi intumwa yabwo iboheshejwe umunyororo, nsigure ivyabwo nshize amazinda, nk'uko bimbereye kuvuga.

21Kandi Tukiko, umuvukanyi nkunda, umukozi w'umwizigirwa mu vy'Umwami wacu, azobiganira vyose, kugira ngo mumenye ivyanje, uko meze.

22Ni we ndabatumyeko kubwo ivyo nyene, ngo mumenye ivyacu, kandi ngo aremeshe imitima yanyu.

23Amahoro abe mu bavukanyi, n'urukundo rufatanije n'ukwizera, biva ku Mana Data wa twese no ku Mwami Yesu Kristo.

24Ubuntu bw'Imana bubane n'abakunda Umwami wacu Yesu Kristo bose ata bupfunya. "

© 2007 Bible Society of Burundi.

# Filipi

## Filipi 1

1Pahulo na Timoteyo, abakozi ba Kristo Yesu, turabandikiye abera bose bo muri Kristo Yesu b'i Filipi, hamwe n'abazezwashengero n'abakozi baryo. “

2Ubuntu n'amahoro, biva ku Mana Data wa twese no ku Mwami Yesu Kristo bibabemwo.

3Nshima Imana yanje, uko ndabibutse kwose.

4Kandi uko nsenze kwose ndabasengera mwese nezerewe,

5kuko mwafatanije nanje gukwiza ubutumwa bwiza, muhereye ku musi wa mbere, mugashitsa n'ubu.

6Kandi ico nizigiye ntakekeranya, ni uko uwatanguye igikorwa ciza muri mwebwe azogiheraheza gushitsa ku musi wa Yesu Kristo.

7Nanje birambereye kubiyumvirako gutyo mwese, kuko ndabafise mu mutima, kuko mu ngoyi zanje, no mu gukiranira ubutumwa bwiza no kubutsimbataza, mwese musangiye nanje ubuntu bw'Imana.

8Imana ni yo ntanzeko icabona c'ingene ndabagirira igishika mwese, mfise imbabazi za Kristo Yesu. “

9Kandi ico nsengera, ni ukugira ngo urukundo rwanyu rugwire rwongerekane mu bwenge no mu kumenya kwose.

10Murobanure ibidahwana, muhore mutagira ubupfunya canke ibigwisha gushitsa ku musi wa Kristo,

11mwuzuye imbuto zo kugororoka ziheshwa na Yesu Kristo, ngo muheshe Imana icubahiro n'ishimwe.

12Bavukanyi, ndagomba ko mumenya yuko ivyambayeko canecane vyashize imbere ubutumwa bwiza.

13Bituma iminyororo yanje yo kubwa Kristo imenyekana mu basoda bose bahora bacungera irembo ryo kwa Kayisari, no mu bandi bose.

14Kandi abenshi bo mu bavukanyi banje bari mu Mwami wacu, baremeshejwe n'iminyororo yanje, barushiriza gutinyuka kuvuga ijambo ry'Imana bashize amazinda.

15Mugabo bamwe ishari n'ibihari ni vyo bibatera kuvuga ivya Kristo; abandi babivugishwa babitumwe n'umutima mwiza.

16Abo babivugishwa n'urukundo, kuko bazi ko nashiriweho gukiranira ubutumwa bwiza.

17Ba bandi ikeba ni ryo ribatera kuvuga ivya Kristo atari uko bivuye ku mutima, biyumvira ko ari ukwongera kumutoneka mu ngoyi zanje.

© 2007 Bible Society of Burundi.

18Hari ico biriko? Kizima mu buryo bwose, ari mu buryarya ari mu kuri, Kristo avugwa, kandi ivyo ndabinezererewe, kandi nzokwama ndabinezererwa;

19kuko nzi yuko ivyo bizomviramwo agakiza, munsengeye kandi mfashijwe na Mpwemu wa Yesu Kristo,

20nk'uko niteze cane nkizigira yuko hatazogira ikintu kimaramaza, ariko ko mu bushizi bw'amakenga bwanje bwose Kristo aheshwe icubahiro n'umubiri wanje, nk'uko bihora biba, na none ko ari ko bizoba, naho noba ndiho canke naho noba mpfuye.

21Kuko kubwanje kubaho ari Kristo, kandi gupfa ari inyungu.

22Ariko namba ari ukubaho mu mubiri, ico kizonyamira imbuto z'igikorwa, kandi sinzi ico mpitamwo.

23Ndazazaniwe muri ivyo bibiri, kuko nifuza gutaha ngo mbane na Kristo, kuko ari co kirushirije cane.

24Yamara kuguma mu mubiri ni co corushiriza kubagirira ikimazi.

25Kandi ko nizigiye ivyo, ndazi neza yuko nzogumaho, nkabana namwe mwese, kugira ngo muje imbere, munezererwe ukwizera;

26ngo muzorushirize kunyirata muri Kristo Yesu nsubiye kugaruka i wanyu.

27Ariko kimwe gusa, ingeso zanyu zimere nk'uko bibereye ubutumwa bwiza bwa Kristo, kugira ngo nje kubagendera canke ntaje, numve ivyanyu ko muhagaze mushikamye mufise impwemu imwe, muhuje umutima mu kurwanira ukwizera ubutumwa bwiza,

28ko mudakangwa n'abansi ku kintu na kimwe; ico kizobera abo ikimenyetso co guhona, ariko mwebwe ico agakiza, kandi kivuye ku Mana.

29Kuko ico mwagabiwe kubwa Kristo, atari ukumwizera gusa, ariko mwagabiwe no kubabazwa kubwiwe;

30muri muri ya ntambara mwambonanye kandi iyo munyumvana n'ubu.

## Filipi 2

1Nuko namba hari ukuremeshwa muri Kristo, namba hari ukwirurwa kuva mu rukundo, namba hari ugusangira Mpwemu, namba hari imbabazi n'ikigongwe,

2mwuzuze umunezero wanje mwiyumvira kumwe, musangiye urukundo rumwe, muhuje umutima n'inama.

3Ntimugire ico mukora kubwo gukebana canke ukwifata uko mutari, ariko mwicishije bugufi, umuntu wese yiyumvire yuko uwundi amuruta,

4kandi umuntu wese ntiyiyumvire ivyiwe gusa, ariko yiyumvire n'ivyo abandi.

5Mugire wa mutima muri mwebwe wari muri Kristo Yesu.

© 2007 Bible Society of Burundi.

6Uwo, naho yari asanganywe ishusho y'Imana, ntiyiyumviriye yuko kuringanira n'Imana ari ikintu co kwumirako.

7Ariko yisiga ubusa, yakira ishusho y'umushumba, acika uwusa n'abantu.

8Kandi abonetse afise ishusho nk'iyo umuntu, yicisha bugufi, aragamburuka no gushitsa ku rupfu, kandi urupfu rwo ku musaraba.

9Ni co catumye Imana imushira hejuru cane, ikamuha rya zina rirengeye ayandi mazina yose.

10Kugira ngo amavi yose azopfukame mw'izina rya Yesu, ayo ivyo mw'ijuru, ayo ivyo kw'isi n'ayo ivyo i kuzimu.

11Kandi indimi zose zizokwature yuko Yesu Kristo ari Uhoraho, ngo biheshe Imana Data wa twese icubahiro.

12Nuko rero abo nkunda, nk'uko mwamye muganduka mube ari ko mushitsa agakiza kanyu, mutinya muhinda agashitsi, yamara si iyo ndiho gusa, ariko n'ubu nyene naho ntari iyo ni murushirize kugenza gutyo.

13Kuko Imana ari yo ikorera mu mitima yanyu, ikabaha gukunda no gukora ibiyihimbara.

14Mukore vyose ata kwidodomba, ata guharira,

15kugira ngo ntimugire umugayo canke akarohe. Mube abana b'Imana batagira agasembwa, hagati y'abo iki gihe bagoramye ibi vy'uburyo bwose, banduye mukababonekamwo mumeze nk'amatara yakira mw'isi,

16mwerekana ijambo ry'ubugingo; kugira ngo mbone ico nzokwirata ku musi wa Kristo, yuko ntirukiye ubusa kandi ntaruhijwe n'ubusa.

17Ariko asangwa nkwiye gutangwa ko ikimazi kubwo ukwizera kwanyu no kubwo igikorwa cakwo, ndanezerwa, nezeranwa namwe mwese.

18Namwe mube ari ko munezerwa, munezeranwe nanje.

19Ariko nizigijwe n'Umwami Yesu yuko nzobatumako Timoteyo vuba, kugira ngo nanje nzoshire umutima hamwe, ni namenya ivyanyu.

20Simfise uwundi ari n'umutima nk'uwo uwo, yobabara ivyanyu vy'ukuri.

21Kuko bose barondera ivyabo, batarondera ivya Yesu Kristo.

22Ariko murazi ingene uwo twagoranywe nka kurya umwana agoranwa na se, ariko twakoranye igikorwa co gukwiza ubutumwa bwiza.

23Nuko uwo ni we nizigiye yuko ari we nzoca ndabatumako, aho nzomenyera ibizombako.

24Ariko nizigijwe cane n'Umwami wacu yuko nanje nyene nzoza vuba.

© 2007 Bible Society of Burundi.

25 Kandi ndabonye yuko bikwiye kubatumako Epafurodito, muvukanyi dufatanije igikorwa n'intambara, ari we ntumwa yanyu inkorera ivyo nkenye;

26 kuko abagirira igishika mwese, akarandurwa umutima n'uko mwumvise yuko yari arwaye.

27 Kandi koko yari yararwaye ahakwa guhwera. Ariko Imana imugirira imbabazi, kandi si we wenyene, ni jewe yazigiriye, kugira ngo umubabaro wanje ntiwongerekane.

28 Ni co gitumye ngira umwete wo kumurungika, kugira ngo ni mwongera kumubona muzonezerwe, nanje nduhuke umubabaro.

29 Nuko mumwakirane umunezero mwinshi kubwo Umwami wacu; kandi abameze nk'uwo mwame mububaha;

30 kuko yagarukiye hafi yo gupfa kubwo igikorwa ca Kristo, yahevye amagara yiwe, amfasha ivyo mutari mwaheraheje kumfasha.

## Filipi 3

1 Ibisigaye bavukanyi banje, munezererwe mu Mwami wacu. Kubandikira bene ivyo ntikundambira, kandi namwe kurabaremesha.

2 Mwirinde za mbwa, mwirinde za nkozi z'ibibi, mwirinde bamwe bikebagura.

3 Kuko tweho turi abahimbuwe igikoba c'ubugabo, dusenga Imana mu buryo bwa Mpwemu, tukirata Kristo Yesu, ntitwishimire ivyo umubiri;

4 naho jewe nokwishimiye ivyo umubiri. Hogira uwundi wese yokwiyumvira kwishimira ivyo umubiri, nomurusha.

5 Nahimbuwe igikoba c'ubugabo ku musi ugira umunani, ndi uwo mu bwoko bwa Isirayeli, ndi uwo mu muryango wa Benyamini, mu Baheburayo ndi Umuheburayo. Ku vyo gushimikira ivyagezwe, ndi Umufarisayo;

6 ku vyo ishaka nahama ishengero; ku vyo ukugororoka kuzanwa n'ivyagezwe nta wobonye ico angaya.

7 Ariko ivyahora bimbera inyungu ndavyiyumvira ko ari ubuhombe kubwa Kristo.

8 Eka mbere n'ibintu vyose ndavyiyumvira ko ari ubuhombe, kubwo ikibirengeye, ni co kumenya Kristo Yesu Umwami wanje. Kubwo uwo nahomvye ibintu vyose, ndavyiyumvira ko ari ishano, kugira ngo ndonke Kristo,

9 kandi mboneke ko ndi muri we, ntafise ukwanje kugororoka, kumwe kuva mu vyagezwe, ariko mfise kumwe kuzanwa no kwizera Kristo, ni kwo kugororoka kuva ku Mana, guhabwa uwizeye,

10 ngo ndamumenye, menye n'ubushobozi bw'ukuzuka kwiwe, n'ugufatanya na we imibabaro yiwe, nshushanywe n'urupfu rwiwe,

© 2007 Bible Society of Burundi.

11ngo kumbure nshike ku kuzuka kw'abapfuye.

12Si ukugira ngo mpejeje kubihabwa, canke ngo mpejeje gutunganywa rwose, ariko ndabandanya kugira ngo mbone gufata kimwe catumye nanje ubwanje mfatwa na Kristo Yesu.

13Bavukanyi, jeho kubwanje sinibwira yuko maze kugifata, ariko ico nkora ni iki kimwe gusa, nibagira ibiri inyuma, kandi nihutira ibiri imbere,

14ndakovya gushika aho dutanguranirwa, ku mpera y'umuhamagaro w'Imana muri Kristo Yesu wo kuja mw'ijuru.

15Nuko abatunganijwe uko tungana twiyumvire dutyo; kandi namba hari ico mwiyumvira ukundi, Imana izokibahishurira na co.

16Mugabo rero, ukuri dushitsemwo, tube ari kwo tugenderamwo.

17Bavukanyi, munyigane, mwitegereze abagenda batwigana, nk'uko mudufiseko akarorero.

18Kuko benshi bagenda ukundi, abo nababwiye kenshi, n'ubu ndababwira ndira, yuko ari abansi b'umusaraba wa Kristo.

19Iherezo ryabo ni uguhona, imana yabo ni inda, biratana ibiteye isoni vyabo, ivyo isi ni vyo bababaye.

20Tweho i wacu ni mw'ijuru, ni ho twiteze Umukiza ko azova, ni we Mwami Yesu Kristo,

21azohindura imibiri y'amagorwa yacu, ishushanywe n'umubiri w'ubwiza bwiwe, nk'uko afise ubushobozi bumubashisha kwigarurira vyose.

## Filipi 4

1Nuko rero, bavukanyi nkunda mporanira igishika, muri umunezero wanje n'igitsibo nambaye, abo nkunda, muhagarare mushikamye muri mu Mwami wacu.

2Ndahanura Ewodiya, ndahanura na Sintike, ngo bahurize imitima mu Mwami wacu.

3Kandi nawe dufatanije igikorwa vy'ukuri, ndakwinginga ngo wame ufasha abo bagore, kuko twarwaniye ubutumwa bwiza hamwe turi kumwe na Kilementi n'abandi bafatanije nanje, amazina yabo yanditswe mu gitabo c'ubugingo.

4Mwame munezererwa mu Mwami wacu imisi yose; nongeye kubivuga; ni munezerwe.

5Ubugwaneza bwanyu bumenywe n'abantu bose; Umwami wacu ari hafi.

6Ntimugire ico mwiganyira, ariko muri vyose ivyo mugomba bimenyeshwe Imana, mu gusenga no mu kwinginga bifatanije no gukenguruka.

7Maze amahoro y'Imana aruta uko yomenywa n'umuntu wese, azorinda imitima yanyu n'ivyiyumviro vyanyu muri Kristo Yesu. “

© 2007 Bible Society of Burundi.

8 Ibisigaye bavukanyi, ivyo ukuri vyose, ivyo kwubahwa vyose, ibigororotse vyose, ibitanduye vyose, ivyo igikundiro vyose, ibishimwa vyose, ni haba hariho ingeso nziza, ni haba hariho gushimwa, mube ari vyo mwiyumvira.

9 Ivyo mwize, ivyo mwakiriye, ivyo mwumvise, ivyo mwambonanye, mube ari vyo mukora; ni ho Imana nyene amahoro izobana namwe.

10 Ariko ndanezererewe cane mu Mwami wacu kuko ubu mwahavuye mukongera kubabara ivyanje. Kandi mwaranabibabara, ariko mukabura uburyo.

11 Sindabivuze kubwo ubukene, kuko nize kubumbwa n'ivyo mfise uko ndi kose.

12 Nzi gucishwa bugufi, nzi no kugira umurengera; muri cose no muri vyose natiwe ibanga ryo mu vyo guhaga no mu vyo gusonza, ryo mu vyo kugira umurengera no mu vyo gukena.

13 Nshobozwa vyose n'uwumpa inkomezi. “

14 Ariko mwagize neza, kuko mwafatanije nanje amarushwa.

15 Kandi yemwe Bafilipi, namwe ni ico muzi yuko kw'itanguriro ry'ubutumwa bwiza, hamwe nava i Makedoniya, ata rindi shengero rya Kristo ryafatanije nanje mu vyo gutanga no guhabwa, atari mwebwe mwenyene.

16 Kuko n'i Tesalonike na ho mwandungikiyeyo ivyo kumara ubukene si rimwe ni kabiri kose.

17 Si uko ndondera ingabire, ariko ndondera imbuto zigwiririkanya amaronko yanyu.

18 Ariko ndafise ibinkwiye vyose, ndafise umurengera. Ndahaze, kuko mpawe na Epafurodito ivyo mwarungitse, ari umubabwe umota neza, ikimazi cemewe gihimbara Imana.

19 Kandi Imana yanje izobamara ubukene bwanyu bwose, nk'uko itunga ry'ubwiza ryayo riri ryo muri Kristo Yesu.

20 Nuko icubahiro kibe ico Imana yacu, ni yo Data wa twese, ibihe bitazoshira. Amina.

21 Muntahirize abera bose bo muri Kristo Yesu. Bavukanyi turi kumwe barabatasha.

22 Abera bose barabatasha, canecane abo mu rugo kwa Kayisari.

23 Ubuntu bw'Umwami Yesu Kristo bubane n'imitima yanyu.

© 2007 Bible Society of Burundi.

Kolosayi

## Kolosayi 1

1Pahulo, nagizwe intumwa ya Kristo Yesu n'uko Imana yabigomvye, na Timoteyo umuvukanyi,

2turabandikiye bavukanyi bo muri Kristo bera b'abizigirwa, muri i Kolosayi. Ubuntu n'amahoro biva ku Mana Data wa twese bibabemwo.

3Dushima Imana Se w'Umwami wacu Yesu Kristo, twama tubasengera ubudasiba,

4kuko twumvise ukwizera Kristo Yesu kwanyu, n'urukundo mufitiye abera bose,

5kubwo ivyizigirwa mwabikiwe mw'ijuru, ivyo mwumvise kera, mw'ijambo ry'ukuri kw'ubutumwa bwiza,

6bwabashitseko, nk'uko buri mw'isi yose bwama imbuto bugwira, kandi no muri mwebwe bugenza butyo, uhereye wa musi mwumviye mukamenya ubuntu bw'Imana vy'ukuri, “

7nk'uko mwigishijwe n'uwo dukunda Epafura, umugurano mugenzi wacu, ni we mukozi wa Kristo wo kwizigirwa abagaburira ivya Kristo mu gishingo cacu,

8kandi ni we yatumenyesheje urukundo rwanyu muhabwa na Mpwemu.

9Ni co gituma natwe, uhereye igihe twavyumviye, tudahengeshanya kubasengera, no kubasabira ngo mwuzuzwe ukumenya ivyo igomba n'ubwenge bwose no kumenya ivyo impwemu.

10Kugira ngo mugende nk'uko bibereye abo Umwami wacu, mumunezereza muri vyose, mwama imbuto mu bikorwa vyiza vyose, mugwizwa no kumenya Imana,

11mushobozwa n'ubushobozi bwose, nk'uko inkomezi z'ubwiza bwayo ziri, ngo mwihangane rwose, ntimurambirwe, mubigiranye umunezero.

12Mushime Data wa twese yabashoboje kuraganwa n'abera umugabane wo mu muco;

13yadukijije ububasha bw'umwiza, atwimurira mu bwami bw' Umwana wiwe akunda.

14Muri uwo ni ho dufise ugucungurwa, ni kwo guharirwa ivyaha vyacu.

15Ni we shusho y'Imana itaboneka, ni we mfura mu vyaremwe vyose,

16kuko muri we ari ho vyose vyaremewe, ivyo mw'ijuru n'ivyo mw'isi, ibiboneka n'ibitaboneka, uri intebe z'icubahiro, uri ubwami, uri ubukuru, uri ububasha; vyose vyaremwe na we, biremerwa kuba ivyiwe.

17We yabayeho vyose bitarabaho, kandi muri we vyose ni ho bifataniye.

18Ni we mutwe w'umubiri, ni wo shengero, kandi ni we tanguriro, ni we mfura mu kuva mu bapfuye, kugira ngo abe agaheta muri vyose.

19Kuko Imana yahimbawe no kumuvyagizamwo ukwuzura kwayo kwose.

© 2007 Bible Society of Burundi.

20Yahimbawe kandi no kumuha kwuzuza vyose na yo, ari ivyo mw'isi, ari ivyo mw'ijuru, izanishije impore amaraso yo ku musaraba wiwe.

21Namwe abari baratandukanijwe n'Imana kera, mugahindurwa abansi bayo mu mitima yanyu n'ivyo mwakoze bibi.

22None ubu yarabujuje na yo abuzurije mu mubiri wiwe w'umuntu kubwo urupfu yapfuye, ngo abashikane imbere yayo muri abera, mudafise agasembwa, mutagira ico mwogawa;

23asangwa muhora mwizeye, mushinzwe neza mutanyiganyiga, mudatirimuka mu vyizigiro biheshwa n'ubutumwa mwumvise, bwavuzwe mu baremwe bose bo musi y'ijuru, ubwo jewe Pahulo nacikiye umukozi wabwo.

24None nezererewe amagorwa yanje yo kubwanyu, kandi ivyasigaye ku marushwa ya Kristo nanje ndabishitsa mu mubiri wanje, kubwo umubiri wiwe, ni wo shengero,

25iryo nacikiye umukozi, nk'uko nahawe n'Imana ububwiriza bwo kugaburira mwebwe, kugira ngo nkwize ijambo ry'Imana rishitse,

26ni ryo banga ryari ryarahishijwe uhereye kera hose n'ibihe vyose, ariko noneho ryahishuriwe abera bayo,

27abo Imana yakunze kumenyesha itunga ry'ubwiza bw'iri banga, rivugwa mu banyamahanga, ni ryo Kristo ari muri mwebwe, ivyizigiro vyo kuzoronka ubwiza.

28Natwe ni we twamamaza, duhanura umuntu wese, twigishisha umuntu wese ubwenge bwose, ngo dushikirize Imana umuntu wese ahinguriwe muri Kristo;

29ico ni co kintamisha, ndabirwanira nk'uko ubushobozi bwiwe buri, bunkoreramwo bishimitse.

## Kolosayi 2

1Ndagomba ko mumenya ukuntu ndabarwanira intambara, mwe n'abo i Lawodikiya n'abatarankubita ijisho bose uko bangana;

2kugira ngo imitima yabo ireme, kuko bamatanirijwe mu rukundo ngo bahabwe itunga ryose ry'ugutahura ata mazinda, babone kumenya ibanga ry'Imana, ni ryo Kristo.

3Muri we ni ho itunga ryose ry'ubwenge n'ukumenya ryahishijwe.

4Mvuze ivyo kugira ngo ntihagire uwubahendagirisha akarimi gasosa.

5Kuko naho ntari kumwe namwe ku mubiri, ndi kumwe namwe ku mutima, nezerewe kandi mbona ugushira hamwe kwanyu kwiza, n'ugushikama mu kwizera Kristo kwanyu.

6Nuko nk'uko mwakiriye Kristo Yesu Umwami wacu, mube ari ko mugendera muri we,

© 2007 Bible Society of Burundi.

7mumushinzemwo imizi, mumwubakwamwo, mushikamishijwe n'ukwizera nk'uko mwigishijwe, murushiriza gushima.

8Mwirinde, ntihakagire uwubagira imbohe, abanyagishije ubwenge bw'abantu ari ibihendo vy'ubusa, bikurikira akaronda k'imigenzo y'abantu, bikurikira ivya mbere vyo mw'isi, bidakurikira Kristo.

9Kuko muri we ari ho haba ukwuzura kwose kw'Ubumana mu buryo bw'umubiri.

10Kandi mwuzurizwa no kumubamwo, ni we mutwe w'ubukuru bwose n'ububasha bwose.

11Kandi muri we mwahimbuwe igikoba c'ubugabo kutari uko intoke, hamwe mwiyambura akameremere k'umubiri, ni kwo guhimburwa kwo muri Kristo;

12kuko mwahambanywe na we mw'ibatizwa, ni ho kandi mwazuranywe na we, kubwo kwizera ubushobozi bw' Imana yamuzuye mu bapfuye.

13Kandi hamwe mwari mugipfuye mwishwe n'ibicumuro vyanyu n'ukudahimburwa igikoba c'ubugabo kw'imibiri yanyu, yabagiranye bazima na we, imaze kuduharira ibicumuro vyacu vyose,

14ihanaguye n'ikete itwagiriza, irimwo amabwirizwa yaduhama, iyikura hagati yacu na yo, iyibamba ku musaraba.

15Kandi yambuye abakuru n'abafise ububasha, ibatetetereza mu maso ya bose, ibashorera bafashwe mpiri kubwo uwo musaraba.

16Nuko ntihakagire uwubahinyura ku biribwa, mu vyo imisi mikuru, mu vyo ukwezi kubonetse canke mu vyo isabato.

17Ivyo vyari igitutu c'ivyari birariye kuzoza, ariko umutumba ubwawo ni uwa Kristo.

18Ntihakagire umuntu abagunga impera yanyu, nk'uko yigombera ubwiwe, ayibagungishije kwicisha bugufi no gusenga abamarayika, aguma mu vyo yabonye gusa, atewe kwihimbariza ubusa n'ubwenge bw'akameremere kiwe,

19kandi atifatanya na wa Mutwe, kuri wo umubiri wawo wose, ufashijwe n'ingingo n'imitsi, ugateranywa neza na vyo, ni ho uronka gukura kwawo gutangwa n'Imana.

20Asangwa mwarapfanye na Kristo, mukareka ivya mbere vy'isi, Ni igiki gituma mwemera kuganzwa na ya mabwirizwa, nk'abazokwama bari kw'isi—

21ngo, Ntugafateko, ntugatamireko, ntugakoreko;

22kandi ivyo vyose biba biheze iyo biriwe--mukumvira ivyagezwe n'abantu n'inyigisho zabo?

23Ayo mabwirizwa koko afise ishusho y'ubwenge, kuko abwiriza gusenga nk'uko abantu biraritse, no kwicisha bugufi, no kwibabaza umubiri, ariko ntagira ishikanwa ryo kubuza ukwifuza kw'akameremere k'umuntu.

© 2007 Bible Society of Burundi.

# Kolosayi 3

1 None rero asangwa mwarazuranywe na Kristo, murondere ibiri hejuru, iyo Kristo ari, avyagiye i buryo bw'Imana.

2 Mushire imitima ku vyo mw'ijuru, ntimuyishire ku biri mw'isi.

3 Kuko mwapfuye, kandi ubugingo bwanyu bukaba buhishanijwe hamwe na Kristo mu Mana.

4 Kristo, ni we bugingo bwacu, ni yerekanwa, namwe muzoca mwerekanwa muri kumwe mu bwiza bwiwe.

5 Nuko mwice ingingo zanyu ziri mw'isi, ubushakanyi, ibihumanya, ukwifuza kw'umubiri, ukwifuza kubi kwose, no kwifuza ivyo abandi, ni kwo gusenga ibigirwamana;

6 ivyo ni vyo bizanira ishavu ry'Imana abantu b'intabarirwa.

7 Namwe mwabigenderamwo kera, hamwe mwaba muri vyo.

8 Ariko noneho mwiyambure n'ibi vyose: ishavu, kujingitwa, urwanko rw'ubusa, gucokorana, kandi ntihakagire amajambo ateye isoni ava mu kanwa kanyu.

9 Ntimukabeshane, kuko mwiyambuye umuntu wa kera n'ibikorwa vyiwe,

10 mukambara umuntu musha, ahindurwa musha ngo agire ubwenge, amere nk'ishusho y'Iyamuremye.

11 Aho ntihaba Umugiriki canke Umuyuda, uwahimbuwe igikoba c'ubugabo canke uwutahimbuwe igikoba c'ubugabo, uwuvuga indimi zidatahurika canke umunyarufuri, umugurano canke uwidegemvya; ariko Kristo ni vyose, kandi ari muri bose.

12 Nuko rero, nk'uko bibereye abatoranijwe n'Imana bera bakundwa na yo, mwambare umutima w'ikigongwe, ineza, ukwicisha bugufi, ugutekereza n'ukwihangana,

13 mwihanganirana, muharirana, iyo umuntu agize ico apfa n'uwundi. Nk'uko Umwami wacu yabahariye, namwe mube ari ko muharirana.

14 Ikigeretse kuri ivyo vyose mwambare urukundo, ni rwo mugozi uzana gutungana.

15 Kandi amahoro ya Kristo aganze mu mitima yanyu, ayo mwahamagariwe ngo mube umubiri umwe. Kandi mube abama bakenguruka.

16 Ijambo rya Kristo ribe muri mwebwe rigwiriye, ririmwo ubwenge bwose. Mwigishanye, muhanurane, muririmba zaburi n'indirimbo n'amatazirano y'ivya Mpwemu, muririmbire Imana mu mitima yanyu mubiheshwa n'ubuntu bwayo.

17 Kandi ivyo muzokora vyose, mu majambo no mu bikorwa, muhore mubikora vyose mw'izina ry'Umwami Yesu, mushima Imana Data wa twese kubwo uwo.

18 Bagore, mugamburukire abagabo banyu, nk'uko bibereye abari mu Mwami wacu.

19 Bagabo, mukunde abagore banyu, ntimubabere umururazi.

© 2007 Bible Society of Burundi.

20Bana, mwumvire abavyeyi banyu muri vyose, kuko ivyo ari vyo bishimwa mu Mwami wacu.

21Ba se, ntimukaratse abana banyu, ngo ntibacike ivutu.

22Bagurano, mwumvire ba shobuja bo ku mubiri muri vyose, atari iyo babahagarikiye gusa, nk'abanezereza abantu, ariko mubakorere mushize ubwira mu mitima yanyu, mwubaha Shobuja mukuru.

23Ivyo mukora vyose, mubikore bivuye mu mutima, nk'abakorera Shobuja mukuru, ntimube nk'abakorera abantu,

24muzi yuko muzohabwa impera na Shobuja mukuru, ni yo wa mugabane. Shobuja uwo Kristo ni we mukorera.

25Kuko uwugabitanya azokwihorwa nk'uko yagabitanije. Kandi nta kurobanura ku butoni.

## Kolosayi 4

1Ba shebuja, namwe ni mugirire abakozi banyu ibigororotse n'ibibereye, kuko muzi yuko namwe mufise Shobuja mw'ijuru.

2Mukovye mu gusenga, mukubemwo maso, mushima;

3kandi natwe nyene mudusengere, kugira ngo Imana itwugururire urugi rwo kuvuga ijambo ryayo, tuvuge ibanga rya Kristo, iryo mbohewe,

4kugira ngo ndariserure nk'uko nkwiye kuvuga.

5Mugendane ubwenge ku bo hanze, mugura uburyo mubugwiza.

6Imvugo zanyu zamane ubuntu bw'Imana, zirunzwe umunyu, kugira ngo mumenye ingene mukwiye kwishura umuntu wese.

7Tukiko umuvukanyi dukunda, umukozi w'umwizigirwa, dukorana mu Mwami wacu, azobiganira ivyanje vyose.

8Ni we ndabatumyeko kubwo ivyo nyene, ngo mumenye ivyacu, kandi ngo aremeshe imitima yanyu,

9ndamutumanye na Onesimo umuvukanyi w'umwizigirwa, uwo dukunda, yavuye i wanyu; bazobiganira ivyo ino vyose.

10Arisitariko, uwo dusangiye umunyororo, arabatasha; na Mariko, mwene se wabo wa Barunaba, arabatasha, umwe mwabwirizwa ivyiwe. Ni yaramuka aje i wanyu muzomwakire.

11Na Yesu, ari we Yusito, arabatasha. Abo bonyene bo mu bahimbuwe igikoba c'ubugabo ni bo bakorana nanje kubwo ubwami bw'Imana, kandi bamaze umubabaro.

© 2007 Bible Society of Burundi.

12Epafura w'i wanyu, umushumba wa Kristo Yesu, arabatasha, yama abarwanira mu gusenga kwiwe kugira ngo mushikame, mutunganye rwose, mumenya neza mudakekeranya ivyo Imana igomba vyose.

13Ndamushingira intahe yuko abagirira umwete mwinshi, mwebwe n'abo i Lawodikiya n'abo i Hiyerapoli.

14Luka, umuganga akundwa, na Dema, barabatasha.

15Muntahirize abavukanyi b'i Lawodikiya, na Numfa, n'ishengero ryo mu nzu yiwe.

16Kandi iki cete ni mwaheza kugisomerwa, muzokwitwaririke ko gisomerwa ishengero ry'i Lawodikiya; kandi namwe muzosome ikizova i Lawodikiya nyene.

17Kandi muzobarire Arukipo muti: "Urabe igikorwa c'ubusuku wahawe mu Mwami wacu, ucuzuze.”

18Uku ni kwo gutasha kwanje Pahulo, kwanditswe n'ukwanje kuboko. Mwibuke iminyororo yanje. Ubuntu bubane namwe.

© 2007 Bible Society of Burundi.

# Tesalonike Rya Mbere

## Tesalonike Rya Mbere 1

1 Pahulo, Siluwano na Timoteyo turabandikiye abo mw'ishengero ry'i Tesalonike, bari mu Mana Data wa twese no mu Mwami Yesu Kristo. Ubuntu bubabemwo n'amahoro.

2 Mwese tubashimira Imana imisi yose, tubahoza mu kanwa uko dusenze,

3 twibuka ubudasiba ibikorwa vyanyu biva ku kwizera, n'ubutame buva mu rukundo, n'ukwihangana kuva ku kwizigira Umwami wacu Yesu Kristo, imbere y'Imana yacu, ni yo Data wa twese. “

4 Bavukanyi bakundwa n'Imana, tuzi yuko mwatoranijwe na yo.

5 Kuko ubutumwa bwacu butabashitseko ari amajambo yonyene ariko bwarimwo n'ubushobozi na Mpwemu Yera, no kumara amazinda rwose; namwe murazi ubugene twari tumeze hagati muri mwebwe kubwanyu.

6 Namwe mwaratwiganye, mwigana n'Umwami wacu, mumaze kwakirira ijambo ry'Imana mu marushwa menshi, munezerejwe na Mpwemu Yera,

7 bituma muba ikigereranyo c'abizera bose bari i Makedoniya no muri Akaya.

8 Kuko muri mwebwe humvikanye ijambo ry'Umwami wacu, kandi ntiryumvikanye i Makedoniya no muri Akaya honyene, ariko ukwizera Imana kwanyu kwaramamaye hose; bituma tutarinda kugira ico tuvuga muri ivyo.

9 Kuko bose bivugira ubwabo inkuru z'ingene twaje muri mwebwe, kandi ingene mwahindukiriye Imana, mugaheba ibigirwamana, ngo mukorere Imana nyakuri kandi nzima,

10 kandi ngo mwitege Umwana wayo ko ava mw'ijuru, umwe yazura imukuye mu bapfuye, ni Yesu, adukiza ishavu rigira rize.

## Tesalonike Rya Mbere 2

1 Bavukanyi, ubwanyu murazi yuko ugushika muri mwebwe kwacu kutabaye uko ubusa;

2 ariko tumaze kubabarizwa i Filipi no kuhatetererezwa, nk'uko muzi, dushira amanga mu Mana yacu kubwira mwebwe ubutumwa bwiza bw'Imana turi mu ntambara nyinshi.

3 Kuko uguhanura kwacu kutava mu buzimire, canke mu buhumane, kandi atari uko ubugunge;

4 ariko nk'uko Imana yatwemeye ko turi abo kuzezwa ubutumwa, ni ko tuvuga. Ntituvuga nk'abagomba kunezereza abantu, ariko nk'abagomba kunezereza Imana isuzuma imitima yacu.

© 2007 Bible Society of Burundi.

5 Kuko ata na rimwe twigeze kuvuga ijambo ducishije iruhande, murabizi, canke ijambo ryo guhisha ukunohoka, Imana ni yo cabona c'ivyo.

6 Kandi ntitwarondera icubahiro co ku bantu, ari kuri mwebwe canke ku bandi; naho tuba twarashoboye kubaremera, kuko turi intumwa za Kristo.

7 Ariko twaritonda hagati muri mwebwe, nk'uko umuvyeyi abungabunga abana biwe.

8 Ni ko twabagirira igishika, ni co catumye duhimbarwa no kubaha, si ubutumwa bwiza bw'Imana gusa, ariko n'ubwacu bugingo na bwo, kuko mwabaye abo dukunda rwose.

9 Bavukanyi, muribuka ubutame bwacu n'ubucumukure; twababwira ubutumwa bwiza bw'Imana. Twakora umurango n'ijoro, kugira ngo ntihagire uwo muri mwebwe turemera.

10 Mwebwe muri ivyabona hamwe n'Imana vy'ingene twamerera mwebwe abizera, turi abera, tugororoka, tutariko umugayo.

11 Nk'uko muzi ingene twari tumeze ku muntu wese muri mwebwe, nk'uko se amera ku bana biwe, tubahanura, tubaremesha, dushinga intahe,

12 kugira ngo mugende nk'uko bibereye ab' Imana, ibahamagarira kuja mu bwami bwayo no mu bwiza bwayo.

13 Natwe igituma dushima Imana ubudasiba, ni uko hamwe mwakira ijambo ry'ubutumwa mwatwumvanye, ni ryo ry'Imana, mutaryemeye nk'ijambo ry'abantu, ariko nk'ijambo ry'Imana, nk'uko riri koko, rikorera muri mwebwe abizera.

14 Namwe bavukanyi, mwiganye amashengero y'Imana y'i Yudaya, ari muri Kristo Yesu, kuko ivyo mwababajwe n'ubwoko bwanyu ari bimwe n'ivyo abo bababajwe n'Abayuda,

15 bishe Umwami Yesu n'abavugishwa n'Imana, kandi natwe baratwirukanye, ntibanezereje Imana, barwanya abantu bose;

16 batubuza kubarira abanyamahanga ngo bakire; na ntaryo buzuza ingero y'ivyaha vyabo. Ariko ishavu rirabashikiye kubamara rwose.

17 Ariko twebwe, bavukanyi, hamwe twatandukanywa namwe igihe gito ubwo amaso, ariko si mu mutima, twarushirije kugira umwete wo kubonana namwe imbonankubone, tubafitiye inkumbu nyinshi;

18 kuko twagomba kuza i wanyu, mbere jewe Pahulo kubigomba si rimwe ni kabiri kose, Satani akatubuza.

19 None ivyizigiro vyacu n'iki, canke umunezero, canke igitsibo co mu mutwe twirata? Mbega si mwebwe, imbere y'Umwami wacu Yesu aho azozira?

20 Kuko ari mwebwe cubahiro cacu n'umunezero wacu.

## Tesalonike Rya Mbere 3

© 2007 Bible Society of Burundi.

1 Nuko tutagishoboye kwihangana, dushima gusigara twenyene muri Atenayi,

2 dutuma Timoteyo, muvukanyi, umukozi w'Imana agabura ubutumwa bwiza bwa Kristo, ngo abakomeze abaremeshe ku vyo ukwizera kwanyu,

3 kugira ngo ntihagire uwo muri mwebwe anyiganyizwa n'ayo marushwa; kuko ubwanyu muzi yuko ari ico twashiriweho nyene.

4 Kandi hamwe twari kumwe namwe, twababuriye yuko tutazobura kubabazwa; kandi ni ko vyabaye, murabizi.

5 Nanje ni co catumye ntuma iyo, bitakinkundiye kwihangana, kugira ngo menye ukwizera kwanyu, nikenga ko wa musukanyi yoba yarabasutse, natwe tukaba twaratamijwe n'ubusa.

6 Ariko none Timoteyo arashitse, avuye i wanyu, atuzaniye inkuru nziza y'ukwizera kwanyu n'urukundo rwanyu, kandi yuko mutwibuka neza imisi yose, mudukumbura mugomba kubonana natwe, nk'uko natwe tubakumbura.

7 Ni co catumye bavukanyi, turemeshwa kubwanyu n'ukwizera kwanyu, mu mubabaro wacu wose no mu marushwa.

8 Kuko none turiho, asangwa muhagaze mu Mwami.

9 Ni ishimwe ki twoshobora kwishura Imana kubwanyu, kubwo umunezero wose tubanezererwa imbere y'Imana yacu?

10 Dusenga cane ijoro n'umurango kugira ngo twibonanire namwe imbonankubone, tunonosore ivyasigaye ku kwizera kwanyu.

11 None Imana yacu ubwayo, ni yo Data wa twese, n'Umwami wacu Yesu, agorore inzira yacu yo kuza iyo.

12 Namwe Umwami wacu abagwirize, abongerereze urukundo mukundana, no gukunda abandi bose, nk'uko natwe tumeze kuri mwebwe;

13 kugira ngo aremeshe imitima yanyu, ntigire umugayo, ibe iyera imbere y'Imana yacu ni yo Data wa twese, izosangwe ityo aho Umwami wacu Yesu azozananira n'abera biwe bose.

## Tesalonike Rya Mbere 4

1 Nuko bavukanyi, ibisigaye, turabinginga tubahanura mu Mwami Yesu, nk'uko mwize kuri twebwe ingene mukwiye kugenda no kunezereza Imana (kandi ni ko mugenda), murushirize cane kugenza mutyo.

2 Murazi ivyagezwe twahawe n'Umwami Yesu kubabarira ivyo ari vyo.

3 Ico Imana igomba, ni ukwezwa kwanyu, ko mwirinda ubushakanyi;

4 kugira ngo umuntu wese muri mwebwe amenye kuganziriza uwiwe mubiri mu kwezwa no mu kuwubaha,

© 2007 Bible Society of Burundi.

5atari mu buryo bwo kwangaza umutima mu vyifuzo, nk'uko abanyamahanga batazi Imana bagira;

6ngo umuntu wese ntarenge ibikwiye, kandi ntagunge umuvukanyi wundi kuri ivyo, kuko Umwami wacu ari umuhozi kuri ivyo vyose, nk'uko twababuriye tuvyemeza.

7Kuko Imana itaduhamagariye guhumana, ariko yaduhamagariye kwezwa.

8Ni co gituma uwuvyanka ataba yanse umuntu ariko aba yanse Imana, kandi ari yo ibaha Mpwemu wayo Yera.

9Ariko ivyo gukunda bavukanyi ntimurinda kuvyandikirwa, kuko ubwanyu mwigishijwe n' Imana gukundana;

10kandi ni ko nyene mugiriranira n'abavukanyi bose b'i Makedoniya hose. Ariko bavukanyi turabahanura ngo murushirize kugira rwinshi.

11Kandi mushishikare kwiyorosha, no gukora ivyanyu, no gukoresha amaboko yanyu, nk'uko twababariye,

12kugira ngo mugendane ingeso nziza ku bo hanze, kandi mutagira ico mukenye.

13Ariko bavukanyi, ntitugomba ko muyoberwa ivyo abasinzira itiro ry'urupfu, ngo ntimubabare nka ba bandi badafise ivyizigiro.

14Uko twizera yuko Yesu yapfuye akazuka, tube ari ko twizera yuko abasinziririye muri Yesu, Imana izobazanana na we.

15Iki ni co tubabwira, ni ijambo ry'Umwami twashikirijwe, yuko twebwe abazoba bakiriho, dusigaye gushitsa ku kuza kw'Umwami wacu, tutazokwitangira na gatoya imbere y' abasinziriye.

16Kuko Umwami wacu ubwiwe azoza, amanutse avuye mw'ijuru, aranguruye ijwi rirenga, hamwe n'akamo k'umumarayika mukuru, n'inzumbeti y'Imana. Maze abapfiriye muri Kristo ni bo bazobanza kuzuka;

17maze natwe abazoba bakiriho, dusigaye, tuzoca duteruranwa na bo mu bicu, dusanganirire Umwami mu kirere. Ni ho tuzokwama tubana n'Umwami.

18Nuko mwiruranishe ayo majambo.

## Tesalonike Rya Mbere 5

1Ariko bavukanyi, ivyo ibihe n'imisi ntimurinda kuvyandikirwa.

2Kuko ubwanyu muzi neza yuko umusi w'Umwami wacu uzoza nk'uko igisuma kiza mw'ijoro.

3Aho bazoba bavuga bati: "Hari amahoro, nta nkomanzi; ni ho uguhona kuzobazako giturumbuka, nk'uko ibise biza ku mugore akuriwe, kandi ntibazokwikiza na gatoya."

4Ariko mweho, bavukanyi, ntimuri mu mwiza, ngo uwo musi ubashikeko giturumbuka;

© 2007 Bible Society of Burundi.

5kuko mwese muri abana b'umuco n'abana b'umurango. Ntituri abo ijoro canke abo umwiza.

6Nuko rero ntidusinzire nka ba bandi, ariko twame tugavye, twirinde ibiboreza.

7Kuko abasinzira basinzira mw'ijoro, n'ababorerwa baborerwa mw'ijoro.

8Ariko tweho, ko turi abo umurango, twirinde ibiboreza, twambaye icuma gikingira igikiriza c'ukwizera n'urukundo, kandi twambaye nk'inkofero ukwizigira agakiza.

9Kuko Imana itadushiriyeho kuturakira, ariko yadushiriyeho guheshwa agakiza n'Umwami wacu Yesu Kristo,

10ni we yadupfiriye kugira ngo tubaneho na we, ari iyo turi maso canke dusinziriye itiro ry'urupfu.

11Nuko muhanurane, mukomezanye, nk'uko mubikora nyene.

12Ariko bavukanyi, turabinginga, mumenye abakora muri mwebwe bagatama, babaganza mu Mwami wacu, bakabahanura,

13mububahe rwose mu rukundo kubwo igikorwa cabo. Mubane amahoro.

14Kandi turabahanura, bavukanyi, muhanure abasaragurika batagomba gukora, muremeshe abarandutse imitima, muramire abanyantege nke, mwihanganire bose.

15Mwirinde, ntihagire umuntu yihora uwundi ikibi yamugiriye, ariko mwame mukurikira iciza mu vyo mugiriranira no mu vyo mugirira abandi bose.

16Munezerwe imisi yose;

17musenge ubudasiba;

18mwame mukenguruka muri vyose, kuko ico ari co Imana ibagombako muri Kristo Yesu.

19Ntimukazimye Mpwemu;

20ntimugakengere ivyo abavugishwa n'Imana;

21musuzume vyose, mugumye ivyiza,

22mwirinde icitwa ikibi cose.

23Kandi Imana Nyenamahoro ibe ari yo ibeza rwose. Kandi impwemu yanyu, ubugingo n'umubiri wose hamwe bizigamwe, ngo bizosangwe bitagira umugayo, aho umwami wacu Yesu Kristo azozira.

24Iyibahamagara ni iyo kwizigirwa; no kubikora izobikora.

25Bavukanyi, mudusengere.

26Muramukishe abavukanyi kugumbirana kwera.

27Ndabarahiye Umwami wacu, iki cete ntikizobure gusomerwa mu bavukanyi bose.

© 2007 Bible Society of Burundi.

28Ubuntu bw'Umwami wacu Yesu Kristo bubane namwe.

© 2007 Bible Society of Burundi.

# Tesalonike Rya Kabiri

## Tesalonike Rya Kabiri 1

1Pahulo na Siluwano na Timoteyo turabandikiye abo mw'ishengero ry'i Tesalonike,
bari mu Mana Data wa twese no ku Mwami Yesu Kristo.

2Ubuntu n'amahoro biva ku Mana Data wa twese no ku Mwami Yesu Kristo bibe
muri mwebwe.

3Biradukwiye kwama tubashimira Imana, bavukanyi, nk'uko bikwiye, kuko ukwizera
kwanyu gukura cane, n'urukundo rw'umuntu wese muri mwebwe mukundana rugwira.

4Ni co gituma ubwacu tubirata mu mashengero y'Imana, kubwo ukwihangana kwanyu
n'ukwizera mu guhamwa kwanyu kwose n'amagorwa mushinyiriza.

5Ico ni ikimenyetso co guca imanza kw'Imana kugororotse, ngo muzokwemererwe
gushika mu bwami bw'Imana, ubwo namwe mubabarizwa.

6Kuko ari ibigororotse ku Mana kwishura amarushwa abayabatera,

7no kwishura mwebwe abayaterwa kuruhukana natwe, aho Umwami Yesu
azohishurirwa, ava mw'ijuru, azananye n'abamarayika b'ubushobozi bwiwe,

8hagati mu muriro waka, yishure guhorwa abatamenye Imana n'abatumvira ubutumwa
bwiza bw'Umwami wacu Yesu.

9Bazohanwa, ni kwo guhona kw'ibihe bidashira, kuva mu maso y'Umwami no mu
bwiza bw'ubushobozi bwiwe,

10aho azozira gushimirwa mu bera biwe kuri wa musi, no gutangarirwa kubwo
abamwizeye bose, kuko intahe twashinze muri mwebwe yemewe.

11Ni co gituma tubasengera imisi yose, ngo Imana yacu ibemere ko mumeze nk'uko
bibereye ihamagarwa ryanyu, kandi ishikishe ubushobozi iciza cose munezererwa
n'igikorwa canyu cose kiva ku kwizera:

12kugira ngo izina ry'Umwami wacu Yesu rishimagizwe muri mwebwe, namwe
mushimagizwe muri we, nk'uko ubuntu bw'Imana yacu n'ubwo Umwami Yesu Kristo
buri.

## Tesalonike Rya Kabiri 2

1Turabinginga, bavukanyi, kubwo kuzoza kw'Umwami wacu Yesu Kristo no
kuzokoranirizwa kuri we kwacu,

2ntimushoke munyiganyiga ngo mugwe igihumura, canke ngo muhagarike imitima,
naho mwoba mubitewe n'impwemu canke n'ijambo canke n'ikete rimeze nk'irivuye
kuri twebwe, rivuga yuko umusi w'Umwami wacu uhejeje gushika.

© 2007 Bible Society of Burundi.

3Ntihakagire umuntu abahenda mu buryo na bumwe, kuko utazoza, kwa kureka Imana kutabanje kuboneka, kandi wa muntu w'umugarariji atarahishurwa, ni we mwana wo kuranduka,

4umurwanizi yishira hejuru y'icitwa Imana cose canke igisengwa; nuko azokwicara mu rusengero rw' Imana, yiyerekana ngo ni Imana.

5Ntimwibuka yuko nababwiye ivyo nkiri kumwe namwe?

6Kandi none murazi ikibuza, kugira ngo azohishurwe mu gihe ciwe.

7Kuko ibanga ry'umugararizo n'ubu ririko rirakora, mugabo hari uwubibuza ubu, gushitsa igihe azokurirwaho.

8Ni ho wa mugarariji azohishurirwa, umwe Umwami Yesu azokwicisha impwemu ziva mu kanwa kiwe, azomutituza uguseruka kw'ukuza kwiwe.

9Ukuza kw'uwo mugarariji kuri mu buryo bw'inkomezi za Satani, kuri n'ubushobozi bwose n'ibimenyetso n'ibitangaza vy'ibinyoma,

10n'ubugunge bwose bwo kugabitanya ku bahona, kuko batemeye gukunda ivyo ukuri ngo bakizwe.

11Ni co gituma Imana ibarungikira ubuzimire bubakoreramwo, ngo bizere ibinyoma:

12kugira ngo abatizeye ukuri bose, bagahimbarirwa ukugabitanya, batsindwe n'urubanza.

13Ariko bavukanyi bakundwa n'Umwami wacu, biradukwiye kwama tubashimira Imana, kuko uhereye mu bihe vya kera Imana yabatoranije ngo muronkere agakiza mu kwezwa na Mpwemu no mu kwizera ukuri.

14Ni vyo yabahamagariye, ibahamagarishije ubutumwa bwiza twajejwe, kugira ngo muhabwe ubwiza bw'Umwami wacu Yesu Kristo.

15Nuko bavukanyi, mushikame, mugumye ivyo mwashikirijwe, mwigishijwe, ari ivyo mwigishirijwe mu majambo canke mw'ikete ryacu.

16Ariko, Umwami wacu Yesu Kristo ubwiwe, n'Imana Data wa twese, yadukunze, ikaduha kwirurwa imibabaro guhoraho, bo n'ivyizigiro vyiza biheshwa n'ubuntu bwayo,

17babirure mu mitima yanyu, bayikomeze mu gikorwa cose ciza, n'ijambo ryose ryiza.

## Tesalonike Rya Kabiri 3

1Ibisigaye bavukanyi mudusengere, ijambo ry'Umwami wacu ryamamare rishimagizwe, nk'uko biri no muri mwebwe,

2kandi dukire abantu babi badadika; kuko ukwizera kudafiswe na bose.

3Ariko, Umwami n'uwo kwizigirwa, ni we azobashinga neza abarinde wa Mubi.

© 2007 Bible Society of Burundi.

4Kandi twizigiye Umwami ku vyanyu, yuko ivyo tugeze mubikora kandi muzokwama mubikora.

5Umwami arongore imitima yanyu, ayerekeze ku rukundo rw'Imana no ku kwihangana kwa Kristo.

6Ariko bavukanyi, turabagera mw'izina ry'Umwami wacu Yesu Kristo, kuzibukira umuvukanyi wese w'umunebwe, canke adakurikira ivyo mwashikirijwe natwe.

7Ubwanyu murazi ingene mukwiye kutwigana, kuko tutari abanebwe muri mwebwe,

8ntitwarya ivyo kurya vy' umuntu n'umwe ku busa, ariko twagira ubutame n'ubucumukure, dukora ku murango no mw'ijoro, kugira ngo ntitugire umuntu muri mwebwe tugora.

9Si uko tutavyemerewe, ariko ni ukugira ngo tubabere icitegererezo ngo mutwigane.

10Kuko tukiri kumwe namwe twabageze iki, ngo umuntu wese ni yanka gukora ntakarye.

11Kuko twumvise yuko hariho bamwe bo muri mwebwe bagenda basaragurika, bama bineganegera bakita mu bitabakwiye.

12Ariko abameze bartyo turabagera tubahanura kubwo Umwami Yesu Kristo, gukora ibikorwa batekereje, babone kurya ivyo bironkeye ubwabo.

13Ariko mweho bavukanyi, ntimurambirwe no gukora iciza.

14Ni hagira umuntu atumvira ijambo ryacu ryo muri iri kete, mumwitegereze, ntimufatanye na we, kugira ngo amaramare.

15Ariko ntimumwiyumvire ko ari umwansi wanyu, ariko mumuhanure nka umwana wa So.

16Kandi Umwami Nyenamahoro ubwiwe, yame abaha amahoro ibihe vyose uburyo bwose. Umwami abane namwe mwese.

17Uku ni kwo gutasha kwanje jewe Pahulo, kwanditswe n'ukwanje kuboko, ni co kimenyetso mu kete ryanje ryose: ni ko nandika.

18Ubuntu bw'Umwami wacu Yesu Kristo bubane namwe mwese

© 2007 Bible Society of Burundi.

## Timoteyo Rya Mbere 1

1Pahulo, intumwa ya Kristo Yesu, nk'uko vyagezwe n' Imana Umukiza wacu na Kristo Yesu ivyizigiro vyacu,

2ndakwandikiye Timoteyo, umwana wanje nyakuri mu kwizera. Ubuntu, imbabazi n'amahoro biva ku Mana Data wa twese no kuri Kristo Yesu Umwami wacu bikubeko.

3Nuko guma muri Efeso, nk'uko nakugiriye inama hamwe naja i Makedoniya, kugira ngo uteshe ba bandi ntibigishe ibiteye ukundi.

4Ntibababare ivyo imigani y'ibinyoma n'ivyo kuzura akaboze k'urufatane rw'imiryango katagira iherezo, bidafasha igikorwa c'Imana gikorera mu kwizera, ariko bizana impari.

5Ariko inyanduruko y'ukwigisha kwacu ni ukugira ngo bagire urukundo ruva mu mutima utanduye, utarimwo ijwi ribagiriza ikibi, no ku kwizera kutari ukwo uburyarya.

6Ivyo bamwe barabihushije, bata inzira, baja mu bitagira ikimazi biba ari vyo bavuga.

7Bagomba kuba abigisha b'ivyagezwe, ariko ntibatahura ivyo bavuga n'ivyo bashingira intahe babishimikiye. “

8Ariko turazi yuko ivyagezwe ari vyiza, iyo umuntu abigenjeje nk'uko bikwiye ivyagezwe,

9azi yuko ivyagezwe bitashiriweho umugororotsi, ariko vyashiriweho abagarariji n'ibigaba, abatubaha Imana n'abanyavyaha, abanegura ivyayo n'abakora ibizira, abica ba se na ba nyina, abicanyi,

10abashakanyi, abagabo basambana n'abandi bagabo, abanyaga abantu bakabashora, ababeshi, abarahira nabi, n'ibindi vyose birwanya ukwigisha kuzima,

11gukurikira ubutumwa bw'ubwiza bw'Imana ishemagizwa, ubwo najejwe.

12Ndashimira Kristo Yesu Umwami wacu yabinshoboje, kuko yanyiyumviriye ko ndi uwo kwizigirwa, akampa ubusuku;

13naho nabanje kumutyoza, kumuhiga no kumwambika ibara. Ariko naragiriwe ikigongwe kuko nabikoze ntabizi ntarizera.

14Kandi ubuntu bw' Umwami wacu bwiyongeranyako, bo n'ukwizera n'urukundo rubonerwa muri Kristo Yesu.

15Iri jambo ni iryo kwizerwa, rikwiye kwemerwa rwose, yuko Kristo Yesu yazanywe mw'isi no gukiza abanyavyaha; muri bo jewe ndi agahebuza.

© 2007 Bible Society of Burundi.

16Ariko, icatumye ngirirwa ikigongwe ni ukugira ngo Yesu Kristo anyerekaniremwo gahebuza, ukwihangana kwiwe kwose, mbe icitegererezo c'abazomwizera bakaronka ubugingo budashira.

17Umwami ahoraho, adapfa, ataboneka, ari we Mana imwe yonyene, igitinyiro n'icubahiro bibe ivyayo, ibihe bitazoshira. Amina.

18Iri bwirizwa ndariguhaye, mwana wanje Timoteyo, nk'uko abavugishwa n'Imana bakuvuzeko ubwa mbere, ngo ufashwe na vyo kurwana intambara nziza.

19Ugumye ukwizera, ufise umutima utarimwo ijwi rikwagiriza ikibi; iryo bamwe bashibuye bakamera nk'ubwato busavye mu vy'ukwizera.

20Muri abo, umwe ni Humenayo na Alekisandero, abo nahaye Satani, kugira ngo bibigishe kudatyoza Imana.

## Timoteyo Rya Mbere 2

1Irya mbere y'ibindi vyose, ndabahanura kwingingira abantu bose, kubasengera, kubasabira no kubashimira Imana;

2kandi canecane abami n'abashizwe hejuru bose, kugira ngo twame mu mahoro dutekereje, twubaha Imana turi inyankamugayo rwose.

3Ivyo ni vyo vyiza vyemerwa mu maso y'Imana Umukiza wacu,

4igomba ko abantu bose bakizwa bagashika ku kumenya ivyo ukuri.

5Kuko hari Imana imwe, kandi hari Umuhuza umwe w'Imana n'abantu, na we nyene ni umuntu, ni Kristo Yesu,

6yitanze ko incungu ya bose. Kandi ivyo bishingirwe intahe mu bihe vyavyo,

7ni co nashiriweho kuba umusiguzi n'intumwa (mvuze ukuri, simbeshe) ni umwigisha wo kwigisha abanyamahanga ukwizera n'ivyo ukuri.

8Nuko ndagomba ko abagabo basenga hose, batarika amaboko yera, bataratse, batagira ibihari.

9Kandi n'abagore nyene, ndagomba ko bambara imyambaro biberanye, bagendane isoni badasaragurika kandi badashazisha gutsiba umushatsi, canke izahabu, canke ubudede, canke impuzu z'igiciro kinini,

10ariko bashazishe ibikorwa vy'ingeso nziza, nk'uko bikwiye abagore bavuga yuko bubaha Imana.

11Umugore yige atekereje agamburuka rwose.

12Ariko sinkundira umugore ko yigisha canke ko aganza umugabo, ariko atekereze.

13Kuko Adamu ari we yabanje kuremwa, hanyuma Eva.

14Kandi Adamu si we yahenzwe, ariko umugore ni we yahenzwe, agwa mu bicumuro.

© 2007 Bible Society of Burundi.

15Yamara azokizwa kubwo ukuvyara, ni bashishikara kwizera no kugira urukundo no kwezwa, bifatanye no kwitonda.

## Timoteyo Rya Mbere 3

1Iri jambo ni iryo kwizerwa; umuntu ni yagomba kuzezwa ishengero, aba yifuje igikorwa ciza.

2Nuko umuzezwashengero akwiye kutabako umugayo, kandi akwiye kuba umugabo afise umugore umwe gusa; abe uwutarenza urugero, yitonda, aganza ingeso ziwe, akunda gutanga indaro, afise ubwenge bwo kwigisha,

3atari umunoho w'umuvinyu, canke umusinzi, ariko abe umugwaneza, atitoraguza, atari inkunzi y'amahera,

4aganza neza abo mu rugo rwiwe, abana biwe bamwumvira, yanka umugayo wose.

5(Uwutazi kuganza abo mu rugo rwiwe yoshobora ate kuzigama ishengero ry'Imana?)

6Kandi ntakwiye kuba muto mu kwizera, kugira ngo ntiyikakishe, ngo atembe, agacirwako iteka wa mugarariji yaciriweko.

7Kandi akwiye gushingirwa intahe neza n'abo hanze, kugira ngo ntatembere mu mugayo no mu mutego wa wa mugarariji.

8Kandi n'abadiyakoni b'ishengero na bo nyene, bakwiye kuba inyankamugayo batavuga indimi zibiri, kandi ntibabe abatwawe n'umuvinyu mwinshi, canke abifuza inyungu mbi.

9Ariko bagumye ibanga ry'ukwizera, bafise imitima itarimwo ijwi ribagiriza ikibi.

10Kandi abo babanze kumenyerezwa, maze ni batabonekako umugayo babone gukora igikorwa c'ibango ryabo.

11N'abagore nyene babe inyankamugayo, batarementaniriza abandi, batarenza urugero, bizigirwa muri vyose.

12Umukozi w'ishengero wese abe umugabo afise umugore umwe gusa, aganza neza abana biwe n'abo mu rugo rwiwe.

13Kuko abakoze neza ico gikorwa c'ibango ryabo bironkera ikibanza c'iteka n'umwidegemvyo mwinshi mu kwizera Kristo Yesu.

14Nkwandikiye ivyo, nizigiye ko nzoza i wawe vuba.

15Ariko ni naba ngitevye ni ukugira ngo uzomenye uko bikwiye kugenzwa mu ngoro y'Imana, ni yo shengero ry'Imana nzima, vyongeye ni yo nkingi ishigikiye ukuri.

16Nta wuhakana yuko ibanga ryo kwubaha Imana ridahambaye cane, ni iri: umwe yerekanywe afise umubiri, akaboneka ko ari umugororotsi mu mpwemu, akabonwa n'abamarayika, akamenyekanishwa mu banyamahanga, akizererwa mw'isi, akaduzwa agahabwa ubwiza.

© 2007 Bible Society of Burundi.

## Timoteyo Rya Mbere 4

1Ariko Mpwemu avuga avyeruye yuko mu bihe bizoza bamwe bazota ivyizerwa, bagashira umutima ku vyo impwemu zizimiza no ku vyo inyigisho z'abadayimoni,

2bavugisha uburyarya bw'abanyabinyoma, batewe ikidodo mu mitima yabo ibagiriza ikibi,

3babuza kurongora no kurya ivyo kurya, kandi ari vyo Imana yaremye kugira ngo abizera, bakamenya ivyo ukuri, babirye bashima.

4Ico Imana yaremye cose ni ciza, ntiharimwo ico gutabwa, iyo cakiriwe n'uwushima;

5kuko kiba gihezagiwe n'ijambo ry'Imana no gusenga.

6Ni wibutsa abavukanyi ivyo, uzoba uri umukozi mwiza wa Kristo Yesu, yarerewe mu majambo y'ukwizera n'ayo inyigisho nziza wakurikiye.

7Ariko imigani ihumanya n'iyo abakecuru ntuyemere. Wimenyereze kwubaha Imana;

8kuko kwimenyereza kw'umubiri kugira ikimazi kuri bike, ariko kwubaha Imana kugira ikimazi kuri vyose, kuko kuzana isezerano ry'ubugingo bw'ubu n'ubuzoza.

9Iryo jambo ni iryo kwizerwa rikwiye kwemerwa rwose.

10Kuko igituma turuha tukama mu ntambara ari uko twizigiye Imana nzima, ni yo Mukiza w'abantu bose, canecane w'abizera.

11Wame ubwiriza ivyo kandi uvyigisha.

12Ntihakagire uwukugayira ubusore, ariko ubere abizera ikigereranyo mu vyo uvuga, mu ngeso zawe, mu rukundo, mu kwizera no ku mutima utanduye.

13Gushitsa aho nzozira wame ugira umwete wo gusomera abantu, kubahanura no kubigisha.

14Ntiwanjanjwe ku ngabire iri muri wewe, imwe waheshwa n'ivyo abavugishwa n' Imana mu kurambikwako ibiganza vy'abakuru.

15Ivyo ubishireko umwete, uvyamemwo, kugira ngo kuja imbere kwawe kubonekere bose.

16Wirinde ubwawe no ku vyo wigisha. Wame ushishikara ivyo, kuko ni wagira utyo uzokwikizanya n'abakwumva.

## Timoteyo Rya Mbere 5

1Ntuhambarire umutama, ariko umuhanure nka so, abakiri bato n'imisore ubahanure nk'abavukanyi bawe.

2Abatamakazi nyene ubahanure nka ba nyoko, abakiri bato n'abigeme nka bashiki bawe, uri n'umutima utanduye na gatoya.

3Wubahe abapfakazi b'inyakamwe vy'ukuri.

© 2007 Bible Society of Burundi.

4Ariko, umupfakazi wese, namba afise abana canke abuzukuru, ni babanze kwiga kwubaha Imana ku vyo bagirira ababo, no kwishura ivyiza abavyeyi babo; kuko ivyo ari vyo bishimwa mu maso y'Imana.

5Umupfakazi w'inyakamwe asigaye ari umwe, yizigira Imana, agashishikara kwinginga no gusenga ku murango no mw'ijoro.

6Ariko, uwihaye ukwifuza aba apfuye ahagaze.

7Ubabwirize ivyo, kugira ngo ntibabeko umugayo.

8Ariko umuntu ni atatunga abo mu nzu y'i wabo, canecane abiwe, azoba yihakanye ukwizera, kandi azoba abaye hanyuma y'uwutizera.

9Ntihakagire umupfakazi yandikirwa gufashwa ataramara imyaka mirongo itandatu y'amavuka, kandi handikwe uwari afiswe n'umugabo umwe gusa.

10Handikwe uwushimirwa ibikorwa vyiza, namba yararera abana, namba yaratanga indaro, yaroza ibirenge vy'abera, yarafasha ababababaye, yarashishikara gukurikira ibikorwa vyiza vyose.

11Ariko abapfakazi bakiri bato ntubemerere, kuko kwifuza kw'umubiri ni kwamara kubatera kugarariza Kristo bazogomba kurongorwa,

12bagatsindwa n'urubanza kuko bavuye mw'isezerano ryabo rya mbere.

13Kandi ikindi, biga kugira ubunebwe, bagenda imihana; ariko rero si ubunebwe gusa, ikigeretseko bararegeteranya bita mu bitari ivyabo, bavuga ivyo badakwiye.

14Ni co gituma ngomba ko abapfakazi bakiri bato barongorwa, bakavyara abana, bakubaka ingo zabo, ntibahe umwansi urwitwazo rw'ibitutsi.

15Kuko n'ubu bamwe bamaze guta inzira, ngo bakurikire Satani.

16Umugore wese yizera namba afise incuti z'abapfakazi, abafashe, ishengero ntiriremerwe, ribone gufasha abapfakazi b'inyakamwe.

17Abakuru b'ishengero baganza neza ni babiyumvire ko bakwiye guhabwa icubahiro kirushiriza, kandi canecane abacumukura mu kuvuga ijambo ry'Imana no mu kwigisha.

18Kuko icanditswe kivuga, ngo Ntimuzorumye umunwa w'inka iriko irasekura ingano; kandi ngo Umukozi akwiye ingero yiwe.

19Umukuru ntukemere ico bazomukuregako hatabonetse ivyabona bibiri canke bitatu.

20Abakora ivyaha ubahanire mu maso ya bose, kugira ngo abandi na bo batinye.

21Ndakwihanikiririza mu maso y'Imana na Yesu Kristo n'imbere y'abamarayika batoranijwe, witondere ivyo, ntuce urwo umwe, ntukore ivyo guca urwa nkunzi.

22Ntukagire umuntu wihutira kurambikako ibiganza, kandi ntugafatanye n'abandi mu vyaha vyabo. Uzokwame wirinda ubuhumane.

© 2007 Bible Society of Burundi.

23Uhereye ubu ntunywe amazi gusa, ariko unywe n'utuvinyu dukeya kubwo mu nda
hawe, kuko urwaragurika.

24Hari abantu ivyaha vyabo biboneka bikabatanga mu kuja mu rubanza; hari n'abandi
bibaza inyuma.

25Kandi ibikorwa vyiza na vyo ni uko, hari ibiboneka; kandi n'ibitameze bityo
ntibishobora kunyegezwa.

## Timoteyo Rya Mbere 6

1Abaja bose bari mu buja ni biyumvire ba shebuja ko bakwiye kwubahwa rwose, ngo
izina ry'Imana n'ukwigisha ntibitukwe.

2Kandi abafise ba shebuja bizera, ntibagayishwe n'uko ari abavukanyi, ariko
barushirize kubakorera, kuko abagirirwa ico kimazi ari abizera n'abakundwa.
Uzokwigishe ivyo, ubibahanure.

3Umuntu ni yigisha ukundi, ntiyemere amajambo mazima, ari yo majambo y'Umwami
wacu Yesu Kristo, n'inyigisho zihura n'ukwubaha Imana;

4azoba yikakishije, ata co azi, arwaye ibihari, n'intambara z'amajambo, zivamwo
igono, gutongana, ibitutsi, umwikeko mubi

5n'ibihari bidashira vy'abantu bononekaye ubwenge, bakuweko ivyo ukuri, bibwira
yuko kwubaha Imana ari ukwironkera inyungu.

6Ariko kwubaha Imana gufatanije no kubumbwa n'ivyo ufise kuvamwo inyungu
nyinshi koko.

7Kuko ata co twazanye mw'isi kandi ata co dushobora kuyivanamwo.

8Ariko iyo dufise ivyo turya n'ivyo twambara biba bitubumvye.

9Ariko abagomba kuba abatunzi bagwa mu nyosha no mu mutego no mu kwifuza
kwinshi kw'ubupfu gusinzikaza, kudobeza abantu mu bibonona bikabarandura.

10Kuko gukunda amahera ari imizi y'ibibi vyose; ayo bamwe bifuje, bakazimira,
bagata ukwizera, bitobekeranisha imibabaro myinshi.

11Ariko weho, muntu w'Imana, wame uhunga ivyo, ariko ukurikire ukugororoka,
ukwubaha Imana, ukwizera, urukundo, ukwihangana n'ubugwaneza.

12Wame urwana intambara nziza yo kwizera, ucakire ubugingo budashira, ubwo
wahamagariwe, ukabwaturira ukwatura kwiza mu maso y'ivyabona vyinshi.

13Ndakubwiririza mu maso y'Imana ibeshaho vyose, no mu za Kristo Yesu
yashingishije intahe ukwatura kwiza imbere ya Pontiyo Pilato,

14witondere icagezwe, ntugire agasembwa, ntubeko umugayo, gushitsa ku guseruka
kw' Umwami wacu Yesu Kristo,

© 2007 Bible Society of Burundi.

15kuzokwerekanwa mu gihe cakwo n'Inyabushobozi yonyene, ishemagizwa, ni yo Mwami w'abami, uwuganza abaganza.

16Ni yo yonyene ifise ukudapfa, iba mu muco utegerwa, ata muntu yigeze ayibona, ata wushobora kuyibona. Icubahiro n'ubushobozi bidashira bibe ivyayo. Amina.

17Wihanize abatunzi bo mu vy'iki gihe, ntibibone, canke kwishimira ubutunzi butari ubwo kwishimirwa, ariko bishimire Imana, iduha vyose bisesekaye, ngo tubinezererwe.

18Kandi bakore iciza, babe abatunzi ku bikorwa vyiza, babe abanyabuntu bakunda gutanga,

19bibikire ubutunzi buzoba itanguriro ryiza mu gihe kizoza, kugira ngo bacakire ubugingo nyakuri.

20Ewe Timoteyo, wame uzigama ico wabikijwe, utere ibitugu ibizira vy'amajambo ahumanya n'ukurwana kw'ivyitwa ubwenge atari bwo,

21ubwo bamwe bivuga ko babufise bakazimira, bagata ukwizera. Ubuntu bubane namwe.

© 2007 Bible Society of Burundi.

# Timoteyo Rya Kabiri

## Timoteyo Rya Kabiri 1

1Pahulo, intumwa ya Kristo Yesu, nk'uko Imana yagomvye, intumwa yo kuvuga isezerano ry'ubugingo bubonerwa muri Kristo Yesu,

2ndakwandikiye Timoteyo, umwana wanje nkunda. Ubuntu, imbabazi n'amahoro biva ku Mana Data wa twese no kuri Kristo Yesu Umwami wacu bikubeko.

3Imana nkorera nkurikiye ba sogokuruza, mfise umutima utanduye, utarimwo ijwi rinyagiriza ikibi, ndayishimira yuko nkwibuka ubudasiba, uko nsenze, ijoro n'umurango.

4Nibuka amosozi yawe, ngakumbura kukubona, ngo nuzure umunezero;

5kuko nibutse ukwizera kutari ukwo uburyarya kuri muri wewe, kwabanje kuba muri nyogokuru Lowisi no muri nyoko Ewunike. Ndazi kandi ntakekeranya yuko kukurimwo nawe.

6Ni co gituma ndakwibutsa kuvyura ya ngabire Imana yaguhaye ngo yake, yagushizwemwo no kurambikwako ibiganza vyanje.

7Kuko Imana itaduhaye umutima w'isoni n'ubwoba; ariko yaduhaye uwo ubushobozi, urukundo n'ukwirinda. “

8Nuko ntugire isoni zo gushingira intahe Umwami wacu, canke jewe imbohe yiwe. Ariko ufatanye nanje kwihanganira imibabaro kubwo ubutumwa bwiza, nk'uko ubushobozi bw'Imana bugushoboza,

9yadukijije, ikaduhamagarisha umuhamagaro wera, udatewe n'ibikorwa vyacu, ariko utewe n'uko yabigabiye ubwayo, kandi utewe n'ubuntu bwayo, twaherewe muri Kristo Yesu ibihe vyose bitaraba.

10Ariko none, bwaseruwe n'ukuboneka kw'Umukiza wacu Kristo Yesu, yahinduye urupfu ubusa, ubugingo no kutagipfa akabiserurisha ubutumwa bwiza.

11Nashiriweho kuba umuvuzi, intumwa n'umwigisha w'ubwo butumwa.

12Ni co gituma kandi mbabazwa ntya, yamara ntibintera isoni, kuko nzi uwo nizeye, kandi nzi ntakekeranya yuko ashobora kuzigama ikibitsanyo namubikije gushitsa kuri wa musi.

13Shishikara mu karorero k'amajambo mazima wanyumvanye, ugashigikize ukwizera n'urukundo rubonerwa muri Kristo Yesu.

14Ivyiza wabikijwe, ubizigamishe Mpwemu Yera atubemwo.

15Urazi yuko abo muri Asiya bose banteye ibitugu, muri abo harimwo Fugelo na Herumogene.

© 2007 Bible Society of Burundi.

16Umwami agirire ikigongwe abo kwa Onesiforo, kuko yanduhura kenshi; kandi ntiyatewe n'isoni n'umunyororo wanje,

17ariko, ashitse i Roma, agira umwete wo kundondera, arambona.

18Umwami amuhe kuzoronka imbabazi ziva ku Mwami kuri wa musi. Kandi ivyo yankoreye muri Efeso uko bingana, nta wukurusha kubimenya.

## Timoteyo Rya Kabiri 2

1Weho mwana wanje, ugirire ubushobozi mu buntu buri muri Kristo Yesu,

2kandi ivyo wanyumvanye mu maso y'ivyabona vyinshi, ubishikirize abantu bo kwizigirwa, bazoshobora kuvyigisha n'abandi.

3Ufatanye nanje kwihanganira imibabaro, nk'uko bikwiye umusoda mwiza wa Kristo Yesu.

4Nta musoda yikwegera mu vy'ubu bugingo, ngo azohimbare uwamwandikiye ubusoda.

5Kandi iyo umuntu arushanywa, ntahabwa igitsibo, kiretse arushanijwe nk'uko vyagezwe.

6Umurimyi kuko ari we yacumukuye ni we akwiye kubanza gusoroma ku vyeze.

7Umenye ivyo mvuze, kuko Umwami wacu azoguha ubwenge muri vyose.

8Wame wibuka Yesu Kristo yazutse mu bapfuye, yakomotse mu ruvyaro rwa Dawidi, nk'uko ubutumwa nahawe buvuga;

9ubwo mbabarizwamwo, no kubohwa nkabohwa, nk'inkozi y'ikibi; ariko ijambo ry'Imana ntiriboshwe.

10Ni co gituma nihanganira vyose kubwo abatoranijwe, kugira ngo na bo baronke agakiza kari muri Kristo Yesu, gafatanije n'ubwiza budashira.

11Iri jambo ni iryo kwizerwa, ngo Namba twarapfanye na we, tuzobanaho na we;

12namba twihangana, tuzokwimikanwa na we; namba waramwihakanye, na we azotwihakana;

13naho tutoba abizigirwa, we ahora ari umwizigirwa, kuko adashobora guhindagurika.

14Wame ubibutsa ivyo, ubihanikiririza mu maso y'Imana ntibarwanire amajambo kuko bitagira ikimazi, bigwisha abumva.

15Wame ugira umwete wo kwiha Imana nk'uwamaze kurama, umukozi atarinda guteterwa, aramiriza neza mw'ijambo ry'ukuri.

16Ariko, ibihumanya vy'amajambo y'ubusa ubizibukire, kuko ababivuga bazoshishikara inzira yo kutubaha Imana,

© 2007 Bible Society of Burundi.

17kandi ijambo ryabo rizorandagurana nk'igisebe gishikurana kidakira. Muri abo umwe ni Humenayo na Fileto,

18kuko bazimiye bakava mu vy'ukuri, bavuga ngo ukuzuka kwarahejeje kubaho, bagahenura ukwizera kwa bamwe.

19Ariko ibuye ry' umushinge w'Imana wo kwubakako urakomeye, ryanditsweko iki kimenyetso, ngo Uhoraho arazi abiwe; kandi ngo Umuntu wese avuga izina ry' Uhoraho ave mu kugabitanya.

20Mu nzu nini y'umutunzi ntihabamwo ibikoresho vy'ivyacuzwe mw'izahabu no mw'ifeza gusa, ariko habamwo n'ivyo ibiti n'ivyo ibumba, kandi bimwe babikoresha ivyo icubahiro, ibindi babikoresha ibiteye isoni.

21Umuntu ni yiyeza, akitandukanya n'ivyo, azoba igikoreshwa c'icubahiro, cejejwe, kigirira nyene co ikimazi, catunganirijwe igikorwa ciza cose.

22Ariko kwifuza kw'ubusore uguhunge, maze ukurikire ukugororoka, ukwizera, urukundo n'amahoro, ufatanya n'abambaza Umwami wacu n'imitima itanduye.

23Ariko ibihari vy'ubupfu n'ivyo ubutungu ntukavyemere, uzi yuko bivyara impari z'ubupfu.

24Kandi umushumba w'Umwami wacu ntakwiye gutongana, ariko akwiye kugira ineza kuri bose, no kuba uburyo bwo kwigisha, no kwihangana,

25no guhanurisha uburwaneza abamuhaririza, ngo kumbure, bishobotse, Imana ibahe kwihana ngo bamenye ivyo ukuri,

26bagaruke mu bwitonzi, bave mu mutego wa wa mugarariji yabafashe ngo bakore ivyo agomba.

## Timoteyo Rya Kabiri 3

1Ariko umenye yuko mu misi y'iherezo hazoza ibihe bigoye.

2Kuko abantu bazoba bikunda gusa, bakunda amahera, birarira, bibona, batukana, batumvira abavyeyi, intashima, abanegura ivyo Imana,

3badakunda n'ababo, banka kwuzura, barementanya, batigarura, inkazi, badakunda ivyiza,

4abaguranyi, ibirandamuke, abivyimvya, bakunda ibibahimbara bakabirutisha Imana.

5Bafise ishusho yo kwubaha Imana, ariko bahakana ubushobozi bwakwo. Abameze batyo wame ubatera ibitugu.

6Kuko muri bo harimwo abagabo banyegetera mu mazu, bagatwara abagore batagira imitima, baremerewe n'ivyaha, batwarwa n'ukwifuza kw'uburyo bwinshi,

7bama biga, ariko nta ho bashobora gushitsa ku kumenya ukuri.

© 2007 Bible Society of Burundi.

8Nk'uko Yane na Yambure barwanije Mose, ni ko n'abo bagabo barwanya ukuri, abo ni abononekaye ubwenge, babaye ibihombe ku kwizera.

9Mugabo ntibazoshobora kurengaho; kuko ubusazi bwabo buzogaragarira abantu bose, nk'uko ubwa ba bandi bwagaragaye.

10Ariko weho wakurikiye neza ukwigisha kwanje, ingeso, imigabo, ukwizera, ukutarambirwa, urukundo, ukwihangana,

11guhamwa n'imibabaro, nk'ivyambereyeko muri Antiyokiya, Ikoniyo n'i Lusitira; ivyo nihanganiye vyose mpamwa, kandi vyose Umwami wacu arabinkiza.

12Mbere abagomba bose kugenda bubaha Imana bari muri Kristo Yesu, bazohamwa.

13Ariko abantu babi, bo n'abahumbuzi, bazorushiriza kuba babi, bazimiza bakazimizwa.

14Ariko weho ugume mu vyo wize, ukavyizezwa, kuko uzi abakwigishije.

15Kandi uzi yuko uhereye mu buto bwawe wamye uzi ivyanditswe vyera bishobora kukumenyesha ubwenge bwo kukuzanira agakiza gaheshwa no kwizera Kristo Yesu.

16Ivyanditswe vyose vyahumetswe n' Imana, kandi bifise akamaro ko kwigisha umuntu, kumuhana, kumutunganya no kumutoza indero nziza mu kugororoka;

17kugira ngo umuntu w'Imana abe uwushitse, afise ibimukwiye vyose, ngo akore igikorwa ciza cose.

## Timoteyo Rya Kabiri 4

1Ndakwihanikiririza mu maso y'Imana no mu ya Kristo Yesu azocira urubanza abazoba bariho n'abazoba bapfuye, kandi no kubwo kuzoboneka kwiwe n'ubwami bwiwe.

2Uvuge ijambo ry'Imana, uhore ugavye mu gihe gikwiye no mu kidakwiye, uhane, wihanize, uhanure, mu kwihangana kwose no mu kwigisha.

3Kuko igihe kizoza, batazokwemera kwumva ukwigisha kuzima; ariko kuko amatwi abarya yifuza kwumva ibibanezereza, bazokwirundaniriza abigisha bahuje n'ukwifuza kwabo,

4kandi bazokwiziba amatwi, ngo ntibumve ukuri, bazozimira bakurikire imigani y'ibinyoma.

5Ariko weho, wirinde muri vyose, wihanganire imibabaro, ukore igikorwa c'umuvuzi w'ubutumwa bwiza, ushitse igikorwa c'ibango ryawe.

6Kuko jeho n'ubu ndiko ndasukwa nk'ibisukwa ku gicaniro, igihe co kwitahira kwanje kirashitse.

7Narwanye intambara nziza, narangije urugendo, nazigamye ukwizera.

© 2007 Bible Society of Burundi.

8Ibisigaye mbikiwe igitsibo c'ukugororoka ico Umwami wacu, umucamanza
agororotse, azompa kuri wa musi kandi si jewe jenyene nzogihabwa ariko kandi
n'abakunze kuzoseruka kwiwe bose bazogihabwa.

9Gira umwete wo kuza aho ndi vuba.

10Dema yarantaye, kuko akunze ivyo iyi y'ubu, yigira i Tesalonike. Keresikenti
yagiye i Galatiya Tito nawe i Dalumatiya.

11Luka gusa ni we twasigaranye. Hitana Mariko, umuzane, kuko angirira ikimazi mu
gikorwa c'ibango ryanje.

12Ariko Tukiko namurungitse muri Efeso.

13Aho uzozira uranzanira impuzu yo kwipfuka nasize i Tirowa kwa Karupo, n'ibitabo,
kandi canecane uzozane ivyo insato.

14Alekisandero umucuzi yangiriye inabi nyinshi. Umwami wacu azomwishura
ibikwiranye n'ivyo yakoze.

15Nawe umwirinde kuko yarwanije amajambo yacu cane. “

16Mw'iburana ryanje rya mbere nta wanyunganiye, ariko bose barantaye; icompa
ntibabiharurweko.

17Ariko Umwami wacu ni we yampagarikiye, arandemesha, kugira ngo ubutumwa
ndabuvuge nanje butagabanije, abanyamahanga bose babwumve. Nuko mva mu
menyo y'intambwe.

18Umwami wacu azonkiza ibibi vyose bangirira, azondokora kugira ngo anjane mu
bwami bwiwe bwo mw'ijuru. Icubahiro kibe iciwe, ibihe bitazoshira. Amina.

19Untahirize Purisikila na Akwila n'abo kwa Onesiforo.

20Erasito yagumye i Korinto, ariko Tirofimo namusize i Mileto arwaye.

21Gira umwete wo kuza agatasi katarashana. Ewubulo, Pudenti, Lino, Kilawudiya
n'abavukanyi bose baragutasha.

22Umwami abane n'umutima wawe. Ubuntu bw'Imana bubane namwe.

© 2007 Bible Society of Burundi.

# Tito

## Tito 1

1Jewe Pahulo, umushumba w'Imana, intumwa ya Yesu Kristo, ndabiherewe kwizeza abo Imana yatoranije no kwigisha kumenya ivyo ukuri gufatanije n'ukwubaha Imana.

2Nkora nizigiye kuzoronka ubugingo budashira, ubwo Imana itazi kubesha yasezeranye kera, ibihe vyose bitarabaho.

3Ariko mu bihe yitoranirije yerekanishije ijambo ryayo ubutumwa najejwe, nk'uko Imana Umukiza wacu yageze.

4Ndakwandikiye Tito, umwana wanje nyakuri kubwo ukwizera dusangiye. Ubuntu n'amahoro bikubeko biva ku Mana Data wa twese no kuri Kristo Yesu Umukiza wacu.

5Icatumye ndagusiga i Kirete kwari ukugira ngo utunganye ivyasigaye, kandi mu gisagara caho cose ngo uhashinge abakuru b'ishengero, nk'uko nabikubariye.

6Abe umuntu atabonekako umugayo, afise umugore umwe gusa, afise abana bizera, bataregwa ko ari ibihumbu canke itagonda.

7Kuko umuzezwashengero akwiye kutabako umugayo, nk'umukuru w'abakozi bo mu rugo w'Imana nyene; kandi ntakwiye kuba uwudakurwa kw'ijambo, ushangashirwa, umunywi w'umuvinyu, umusinzi canke uwunohokera inyungu mbi.

8Ariko abe uwukunda gutanga indaro, akunda ivyiza, yitonda, agororoka, yera, yirinda,

9agumya ijambo ryo kwizerwa rihura n'ukwigisha kwacu, kugira ngo abone guhanura abantu mu kwigisha kuzima no gutsinda abamuhariza.

10Kuko hariho benshi b'intagondwa, canecane n'abo mu bahimbuwe igikoba c'ubugabo, bavuga ibitagira ikimazi, n'inyosha mbi.

11Bakwiye kuzibwa iminwa, kuko hari imiryango bagwisha igahenebera, bigisha ibidakwiye kubwo inyungu mbi.

12Umwe muri bo w'umuvugishwa wabo yaravuze ati: "Na ntaryo Abanyakirete, ababeshi, ibikoko bibi n'abanebwe b'abakunzi b'inda.”

13Iyo ntahe yashinze ni iyo ukuri. Ni co gituma ukwiye kubahana cane, kugira ngo babe abahangaye mu kwizera,

14ntibashire imitima ku migani y'ibinyoma y'Abayuda no ku vyagezwe vy'abantu batera ibitugu ukuri.

15Ku badahumanye nta gihumanye, ariko ku banduye, batizera, nta kidahumanye, ariko ubwenge bwabo n'imitima ibagiriza vyaranduye.

© 2007 Bible Society of Burundi.

16Bavuga yuko bazi Imana, ariko bayihakanisha ivyo bakora; n'abo kwankwa urunuka, n'abatumvira Imana, no mu bikorwa vyiza vyose nta co bamaze.

## Tito 2

1Ariko weho uvuge ibihwanye na kwa kwigisha kuzima.

2Bwira abatama ntibarenze urugero, babe inyankamugayo, badasaragurika, bagire kwizera kuzima no mu rukundo no mu kwihangana.

3N'abatamakazi nyene, ubabwire bagende nk'uko bibereye abera, batarementaniriza abandi, batanohorwa imitima n'umuvinyu mwinshi, bigisha ivyiza,

4kugira ngo batoze abagore bakiri bato ubwenge bwo gukunda abagabo babo n'abana babo,

5no kudasaragurika, no kwirinda ubweruzi, no kwubaka ingo zabo, no kuba inda nziza, bagororokere abagabo babo, kugira ngo ijambo ry'Imana ntiritukwe.

6N'imisore ni uko ubahanure ntibasaragurike;

7nawe ubwawe wiyerekane muri vyose nk'ikigereranyo c'ibikorwa vyiza, ugire ukwigisha kudatosekaye, ube inyankamugayo,

8ugire n'ijambo rizima ritogawa, kugira ngo umuntu ari mu ruhande rw' abansi amaramare, abuze ikibi yotuvuga.

9Hanura abakozi bagororokere ba shebuja, babahimbare muri vyose, ata guharira,

10badakorakora, ariko berekane ukuyoboka kwiza kwose, kugira ngo muri vyose basharize ivyigishwa vy'Imana, Umukiza wacu.

11Kuko ubuntu bw'Imana bwaserutse, buzanira abantu bose agakiza,

12butwigisha kwikunkumura ukutubaha Imana n'ukwifuza ivyo isi, bukatwigisha kwama tudasaragurika, tugororoka, twubaha Imana, muri kino gihe,

13twitega ivyizigiro vy'amahirwe no kuzoseruka kw'ubwiza bwa Yesu Kristo, ni we Mana yacu ihambaye n'Umukiza,

14yatwiguze kugira ngo aducungure, adukureko ivyo twagabitanije vyose, kandi yihumanurire ubwoko ngo babe icibare ciwe, barwane ishaka ry'ibikorwa vyiza.

15Wame uvuga ivyo, ubahanura, ubahana, nk'uwufise ububasha rwose. Ntihakagire uwugukengera.

## Tito 3

1Ubibutse kugamburukira abakuru n'abafise ubushobozi, no kubumvira, no kwitegurira igikorwa ciza cose,

2no kutagira uwo bambika ibara, no kutitoraguza no kwengenga, berekana ubugwaneza bwose ku bantu bose.

© 2007 Bible Society of Burundi.

3 Kuko natwe nyene kera twari ibipfu, turi intabarirwa, tuzimizwa, tujakariye ukwifuza n'ukwinezereza vy'uburyo bwinshi, twama tugira urwanko n'igono, turi abo kwankwa natwe twankana.

4 Ariko ineza y'Imana Umukiza wacu n'urukundo ikunda abantu, bimaze kuboneka,

5 iradukiza, itadukirishije ibikorwa vyo kugororoka twakoze, ariko, ikurikije ubwinshi bw'imbabazi zayo, idukirisha ukwozwa kuzana ukuvyarwa ubwa kabiri, ikadukirisha uguhindurwa basha na Mpwemu Yera,

6 uwo yaducuncuburiyeko kubwa Yesu Kristo Umukiza wacu,

7 kugira ngo tugirwe intungane n'ubuntu bwayo, duce tuba abaragwa b'ubugingo budashira, nk'uko tuvyizigiye.

8 Iryo jambo ni iryo kwizerwa, ndagomba yuko utsindagira ivyo, ubikobereje, kugira ngo abizeye Imana bagire umwete wo gushishikara gukora ibikorwa vyiza. Ivyo ni vyiza, bigira ico bimarira abantu.

9 Ariko, impari z'ubupfu no kudondora ivyo amamuko yabo n'imitongano no guharira ivyo mu vyagezwe, wame ubizibukira, kuko bitagira ikimazi kandi ari ivyo ubusa.

10 Uwuzana ibice ni wamara kumuhanura ubwa mbere n'ubwa kabiri akanka, ntukamwemere,

11 kuko uzi yuko uwumeze atyo agoramye kandi akora ivyaha, yitsindisha.

12 Ni nagutumako Arutema canke Tukiko, uzogire umwete wo kunsanga i Nikopoli; kuko ari ho nagabiye kuzomara agatasi.

13 Witwaririke guherekeza no gusezera neza Zena umuhinga w'ivyagezwe, na Apolo, kugira ngo ntihazogire ico babura.

14 Kandi abacu na bo ni bige gushishikara gukora ibikorwa vyiza ngo babone kumara ubukene ababikwiye rwose, kugira ngo abacu ntibabure ico bamarira abandi.

15 Abo turi kumwe bose baragutasha. Untahirize abadukunda dusangiye ukwizera. Ubuntu bubane namwe mwese.

© 2007 Bible Society of Burundi.

## Filemoni 1

1Pahulo, imbohe ya Kristo Yesu, na Timoteyo umuvukanyi, turakwandikiye Filemoni uwo dukunda, dusangiye igikorwa,

2na Apiya mushiki wacu, na Arukipo tusangiye urugamba, hamwe n'ishengero ryo mu nzu yawe.

3Ubuntu n'amahoro biva ku Mana, Data wa twese, no ku Mwami Yesu Kristo bibabemwo.

4Ndashima Imana yanje ubudasiba, ndaguhoza mu kanwa uko nsenze,

5kuko numvise urukundo rwawe n'ukwizera Umwami Yesu kwawe, ukwo wereka abera bose.

6Ndagusaba ngo ugufatanya kwawe mu kwizera gushobore vyinshi kubwa Kristo, mu kumenyekanisha ivyiza vyose vyo muri twebwe.

7Kuko urukundo rwawe rwanteye umunezero mwinshi rukandemesha, kandi imitima y'abera warayiruhuye, muvukanyi.”

8Kubwo ivyo, naho mfise muri Kristo uburenganzira bwose bwo kugutegeka gukora ibikwiye,

9ndahisemwo kukwinginga kubwo urukundo, uko ndi kwose Pahulo umutama, kandi ubu hoho ndi imbohe ya Kristo Yesu.

10Ndakwitwayeko kubwo umwana wanje Onesimo uwo navyariye mu minyororo yanje,

11atakugirira ikimazi kera, ariko noneho atugirira ikimazi twempi.

12Ni we nyene ndakurungikiye, ni we mutima wanje.

13Mba ndamugumije kugira ngo ankorere mu gishingo cawe, mboshwe n'iminyororo y'ubutumwa bwiza.

14Ariko nta co ngomba gukora ntakugishije inama, kugira ngo iciza ukora ntikibe ico ugoberewe, ariko ugikore ubikunze.

15Kumbure icatumye atandukanywa nawe igihe gito kwari ukugira ngo uzomwamane imisi yose.

16Atakiri umushumba wawe, ariko aruta umushumba, ari umwana wa So, akundwa. Akundwa nanje cane, ariko arushiriza gukundwa nawe, mu vyo umubiri no mu Mwami wacu. “

17Nuko namba unyiyumvira ko dusangiye igikorwa, umwakire nk'uko nanje wonyakiriye.

© 2007 Bible Society of Burundi.

18Ariko asangwa hari ico yaguhemukiyeko, canke hari umwenda agufitiye,
ubimparureko.

19Ni jewe Pahulo nandikishije ukuboko kwanje yuko nzovyishura. Reka ndeke
kukubwira yuko uri n'umwenda wanje, uwo mwenda ni wewe ubwawe.

20Ego, muvukanyi, ndakubonemwo ikimazi mu Mwami wacu; unduhure umutima
muri Kristo.

21Ndakwandikiye nizigiye ko uzonyumvira, nzi yuko uzokora n'ibiruta ivyo mvuze.

22Kandi n'ikindi, untegurire indaro; kuko nizigiye yuko muzompabwa kubwo
amasengesho yanyu.

23Epafura, mugenzanje tubohanywe muri Kristo, aragutasha,

24Mariko, Arisitariko, Dema na Luka, abo dusangiye igikorwa, baragutasha.

25Ubuntu bw'Umwami Yesu Kristo bubane n'imitima yanyu. Amina. "

© 2007 Bible Society of Burundi.

# Abaheburayo

## Abaheburayo 1

1Kera mu bihe vyinshi no mu buryo bwinshi, Imana yaganiriye ba sogokuruza ibicishije mu kanwa k'abavugishwa nayo.

2Muri iyi misi y'iherezo yatuganiriye mu kanwa k'Umwana wayo, uwo yashiriweho kuba samuragwa wa vyose, ni we yahaye kurema isi.

3Uwo, kuko ari ugukayangana kw'ubwiza bwayo, n'ishusho y'akameremere kayo, kandi ashigikiza vyose ijambo ry'ubushobozi bwiwe, ahejeje gushiraho umwuhagiro w'ivyaha, avyagira i buryo bw'icubahiro c'ubwami bwo mw'ijuru;

4amaze kuba uwuhambaye kurusha abamarayika, nk'uko izina yarazwe rirengeye ayabo.

5Ni nde wo mu bamarayika Imana yigeze kubarira iti: "Uri Ubura bwanje? Uwu musi ndakuvyaye?" Kandi iti: "Nzomubera Se. Na we azombera Umwana wanje?”

6Kandi aho izokwongera kuzana imfura yayo mw'isi izovuga iti: "Abamarayika b'Imana bose bamusenge.”

7Kandi ivyo abamarayika yarabivuze iti: "Ihindura abamarayika bayo imiyaga, Abasavyi bayo ibahindura imbeya z'umuriro.”

8Ariko, ivyo Umwana wayo yabivuze iti: "Ubutware bwawe, Mana, buhangamye ibihe bidashira, Icumu ry'ubutware bwawe n'icumu ry'uwuganza atunganye.

9Wakunze ukugororoka, wanka ubugarariji, Ni co catumye Imana, ni yo Mana yawe, ikurobanuza amavuta y'umunezero, ikakurutisha bagenzi bawe.”

10Kandi ni wewe, Uhoraho, mu bihe vya kera washizeho itanguriro ry'isi, Kandi amajuru n'igikorwa c'intoke zawe.

11Ivyo bizoshira, ariko weho uzokwamaho; Ivyo vyose bizosaza nk'impuzu,

12Kandi uzobizinga nk'umutamana, Bikuranwe n'ibindi nk'uko impuzu zikuranywa. Ariko weho uri uko wamye, Imyaka y'ukubaho kwawe ntizoshira.

13Ariko ni nde wo mu bamarayika yigeze kubarira iti: "Icara i buryo bwanje, Ushitse aho nzohindurira abansi bawe indava yo musi y'ibirenge vyawe?”

14Mbega abamarayika bose si impwemu ziyikorera, zitumwa gukora igikorwa kubwo abazoragwa agakiza?

## Abaheburayo 2

1Ni co gituma dukwiye kurushiriza kwitwaririka ivyo twumvise, kugira ngo ntidutwarwe akayombekere tukabivako.

© 2007 Bible Society of Burundi.

2Ko ijambo ryavugiwe mu kanwa k'abamarayika ryagumyeho, kandi ibicumuro vyose no kutaryumvira bikagererwa ingero bikwiranye;

3tweho tuzokwikiza dute, ni twanjanjwa ku gakiza kangana gatyo? Kabanje kuvugwa n'Umwami wacu, kakadukomezwako n'abakumvise,

4Imana ifatanije na bo kugashingira intahe, iyishingisha ibimenyetso, ibitangaza, ibikomeye vy'uburyo bwinshi n'ingabire za Mpwemu Yera zagabanganijwe nk'uko yagomvye.

5Kuko atari abamarayika Imana yahaye gutwara isi izobaho, iyo tuvuga.

6Ariko hari aho umuntu yashinze intahe ati: "Umuntu aho umwibuka, Canke umwana w'umuntu aho umugendera?”

7Wamucishije bugufi, aba musi y'abamarayika gato. Wamwambitse ubwiza n'icubahiro nk'igitsibo, Wamuhaye kugaba ibikorwa vy'amaboko yawe.

8Wamuhaye kuganza ibintu vyose, ubishira musi y'ibirenge vyiwe. Ko Imana yamuhaye kuganza ibintu vyose nta co yishigarije itamuhaye kukiganza. Ariko none ntiturabona ibintu vyose biganzwa na we.

9Ariko, uwacishijwe bugufi, akaba musi y' abamarayika gato, ni we Yesu, tumubona yambitswe ubwiza n'icubahiro nk'igitsibo, kubwo imibabaro y'urupfu, kugira ngo ubuntu bw'Imana butume arogorera umuntu wese urupfu.

10Mu vy'ukuri vyari bikwiye ko Imana yo irema vyose kandi ikabibeshaho itunganisha Yesu ukubabazwa; kugira ngo abana benshi baze mu bwiza bwiwe. Kuko Yesu wenyene ari we ndongozi ibarongora ku gakiza.

11Kuko uweza ni abezwa bose bakomotse kuri Imwe; ni co gituma atagira isoni zo kubita abana ba Se

12ati: "Nzobarira abavukanyi izina ryawe, Nzoririmba ndagutazira hagati y'ishengero.”

13Kandi ati: "Nzokwama ndayizigira." Kandi ati: "Ehe twe n'abana Imana yampaye.”

14Nuko rero, kuko abana bahuje inyama n'amaraso, na we ubwiwe yahuje ivyo na bo, kugira ngo abone uko apfa, kandi urupfu rwiwe aruhindurishe ubusa uwufise ubushobozi bw'urupfu, ni we wa mugarariji,

15kandi ngo arokore abajakariye ubwoba bw'urupfu bose, imisi yose y'ukubaho kwabo.

16Kuko tuzi neza ko abamarayika atari bo yatoye, ariko yatoye uruvyaro rwa Aburahamu.

17Ni co catumye vyaramubereye gushushanywa na abana ba Se kuri vyose, ngo abe umuherezi mukuru wo mu vy'Imana, w'imbabazi kandi agororoka, abe indishi y'ivyaha vy'abantu.

© 2007 Bible Society of Burundi.

18Kuko ubwiwe ko yababajwe no kugeragezwa, ashobora no gutabara abageragezwa.

## Abaheburayo 3

1Nuko rero, bavukanyi bera, abasangiye ihamagarwa riva mw'ijuru, ni mwitegereze
Yesu, intumwa n'umuherezi mukuru w'ivyo twizeye tukavyatura,

2agamburukira iyamutoranije, nk'uko Mose yayoboka mu rugo rwayo hose.

3Kuko uwo yiyumviriwe ko akwiye guhabwa icubahiro kiruta ica Mose, nk'uko
ishimwe ry'uwubatse urugo riruta iryo urugo.

4Kuko urugo rwose rugira uwurwubaka, ariko Imana ni yo yubatse ibintu vyose.

5Kandi Mose yayoboka mu rugo rwayo hose nk'umushumba, kugira ngo abe icabona
co gushingira intahe ibizovugwa hanyuma.

7Nuko, nk'uko Mpwemu Yera avuga ati: "Uwu musi aho mwumvira Ijwi ryayo,

8Ntimukomantaze imitima yanyu, nk'uko mwayikomantaje mu gihe co kuratsa, Kuri
wa musi wo kugerageza mu bugaragwa,

9Aho ba sogokuruza banyu bangeragereje bancaca, Bakabona ibikorwa vyanje imyaka
mirongo ine.

10Ni co catumye ngirira umwikomo abo ico gihe, Nkavuga ko bama bazimira mu
mitima yabo, Kandi ntibamenya inzira zanje;

11Nk'uko narahiranye ishavu ryanje Nti: "Ntibazoshika mu buruhukiro bwanje.”

12Bavukanyi, ni mwirinde, ntihagire uwo muri mwebwe agira umutima mubi utizera,
umutera kureka Imana nzima.

13Ariko muhanurane uko bukeye bicitwa uwu musi, ntihagire uwo muri mwebwe
akomantazwa umutima n'uruhendo rw'icaha.

14Kuko twacitse abasangiye Kristo, namba dukomeje rwose ivyizigiro vyacu
twatanguranye gushitsa kw'iherezo;

15bikivugwa, ngo uwu musi aho mwumvira ijwi ryayo, Ntimukomantaze imitima
yanyu, nk'uko mwayikomantaje mu gihe co kuratsa.

16Ni ba nde bamaze kwumva bakayiratsa? Mbega si abavuye i Misiri bose,
barongowe na Mose?

17Kandi ni ba nde yagiriye umwikomo imyaka mirongo ine? Si abacumuye,
imivyimba yabo igahindikirana mu bugaragwa?

18Ni ba nde yarahiye ko batazoshika mu buruhukiro bwayo? Si abatayumviye?

19Kandi tubona ko batashoboye kubushikamwo, kuko batizeye.

## Abaheburayo 4

© 2007 Bible Society of Burundi.

1Nuko, kuko isezerano ryo gushika mu buruhukiro bwayo rikiriho, twiyubare kugira ngo kumbure ntihagire uwo muri mwebwe yiyumvirwa ko akererewe.

2Kuko natwe twabwiwe ubutumwa bwiza nka bo, ariko, ijambo bumvise ntiryabagiriye ikimazi, kuko ritavanzwe n'ukwizera mu mitima y'abaryumvise.

3Kuko twebwe abizeye dushika muri ubwo buruhukiro, nk'uko yavuze iti: "Nk'uko narahiranye ishavu ryanje Ko batazoshika mu buruhukiro bwanje; naho yari yarahejeje ibikorwa vyayo, uhereye ku kuremwa kw'isi.”

4Kuko hari aho yavuze ku vyo umusi w'indwi nk'ibi iti: "Imana yaruhutse ku musi ugira indwi ibikorwa vyayo vyose.”

5Kandi na hano, ngo Ntibazoshika mu buruhukiro bwanje.

6Nuko rero, kuko bukibikiwe bamwe ngo babushikemwo, ariko ababanje kubwirwa ubutumwa bwiza babujijwe kubushikamwo no kutumvira Imana,

7yongera gutoranya umusi, ni wo uwu musi; ivugira mu kanwa ka Dawidi, igihe kirekire cane gihise, nk'uko tumaze kuvuga tuti: "Uwu musi aho mwumvira ijwi ryayo Ntimukomantaze imitima yanyu.”

8Kuko iyaba Yosuwa yarabaruhuye, ntiba yaravuze ubwa nyuma ivyo uwundi musi.

9Nuko rero haracariho uburuhukiro bw'isabato bubikiwe abantu b'Imana.

10Kuko uwushitse mu buruhukiro bwayo, na we aba aruhutse ibikorwa vyiwe, nk'uko Imana yaruhutse ivyayo.

11Nuko tugire umwete wo gushika muri ubwo buruhukiro, ntihagire umuntu agwa, akurikiye ikigereranyo ca ba bandi co kutumvira Imana.

12Kuko ijambo ry'Imana ari rizima, rifise ubushobozi, rifise ubugi buruta ubwo inkota zose, rikinjira n'aho ritanya ubugingo n'impwemu, rigatanya ingingo n'umusokoro, risuzuma ivyo umutima wiyumvira, ukagabira.

13Kandi imbere yayo nta caremwe gihishijwe, ariko vyose vyambaye ubusa, biragaragara, imbere y'amaso y'Iyizotubaza ivyo twakoze.

14Nuko, ko dufise umuherezi mukuru akomeye, yaciye mw'ijuru, ni Yesu Umwana w'Imana, tubangirize ivyo twizera tukavyatura.

15Kuko umuherezi mukuru dufise, atari uwudashobora kubabarana natwe mu ntege nke zacu, ariko ni uwageragejwe uburyo bwose nkatwe, yamara we nta caha yakoze.

16Nuko ni twegere intebe y'ubuntu dushize ubwoba, kugira ngo turonke ikigongwe, tubone ubuntu bwo kudutabara mu gihe gikwiye.

## Abaheburayo 5

1Umuherezi wese mukuru, kuko yarobanuwe mu bantu, ashirirwaho gukorera Imana kubwo abantu, kugira ngo ashikane amashikanwa, atange ikimazi, vyompi vy'ivyaha;

© 2007 Bible Society of Burundi.

2kandi ashobora kwihanganira inyoberwa n'abazimiye, kuko na we nyene hari aho agira intege nke.

3Ni co gituma akwiye no kwitangira ibimazi vy'ivyaha vyiwe, nk'uko abitangira abandi bantu.

4Nta muntu yiha ico cubahiro, kiretse ahamagawe n'Imana, nk'uko Aroni yahamagawe.

5Ni ko biri, na Kristo si we yihaye ico cubahiro co kuba umuherezi mukuru, ariko yagihawe n'iyamubariye iti: "Uri Ubura bwanje, Uwu musi ndakuvyaye."

6Nk'uko yavuze ahandi iti: "Uri umuherezi ibihe bidashira, Mu buryo bwa Melekisedeki."

7Kristo mu misi yabaye mu mubiri, amaze kwinginga no gusenga cane iyashoboye kumukiza urupfu, atakamba cane arira, kandi amaze kwumvirwa kubwo kuyubaha kwiwe,

8naho yari Umwana, yigishwa kwumvira Imana n'ivyo yababajwe,

9kandi amaze guhingurwa rwose, abera abamwumvira bose inyanduruko y'agakiza kadashira,

10Imana imaze kumwita umuherezi mukuru mu buryo bwa Melekisedeki.

11Tumufiseko vyinshi vyo kuvuga, kandi bigoye isobanura, kuko mwabaye ibitumva.

12Naho mwari mugeze kuba abigisha, kuko mumaze igihe kirekire mwiga, mukwiye kwongera kwigishwa namwe nyene ivya mbere vy'itanguriro ry'ivyavuzwe n'Imana. Kandi mwahindutse abakwiye gutungwa n'amata, si ukugaburirwa ivyo kurya bigumye.

13Nuko uwutunzwe n'amata aba ataramenya ijambo ry'ukugororoka, kuko aba ari uruhinja.

14Ariko, ivyo kurya bigumye ni ivyo abakuze, bafise ubwenge, maze kubwo kwama babukoresha, bumenyera gutandukanya ikibi n'iciza.

## Abaheburayo 6

1Nuko rero turengane ivya mbere vya Kristo, twigire imbere, dushike ku vyo gutunganywa rwose, ntidusubire gushiraho itanguriro ryo kwihana ibikorwa vy'impfagusa, no kwizera Imana,

2no kwigisha ivyo kubatizwa, ivyo kurambikwako ibiganza, ivyo kuzuka kw'abapfuye, ivyo gutsindwa n'urubanza kw'ibihe bidashira.

3Imana ni yabikunda turagenza dutyo.

4Kuko abamaze kwakirwa n'umuco, bagatamira ingabire iva mw'ijuru, bagasangira Mpwemu Yera,

© 2007 Bible Society of Burundi.

5bagatamira ijambo ryiza ry'Imana, n'ububasha bwo mu gihe kizoza,

6maze bakagwa bakabivamwo, ntibishoboka gusubira kubahindura bashasha ngo
bihane. Kuko bongera kwibambira Umwana w'Imana, bakamutetererereza ahibonekeza.

7Indimo zinyoye imvura yaziguyeko kenshi, iyo zimezemwo ibirimwa bikwiye
abazirimiwe, zironka umugisha w'Imana.

8Ariko iyo zimezemwo imikere n'ibitovu, ziba zisivye, ziba zisigaje gatoya
zikavumwa, iherezo ryazo ni uguturirwa.

9Ariko, abo nkunda, naho tuvuze dutyo, turazi ivyanyu tudakekeranya yuko birusha
ivyo kuba vyiza, kandi bizanana n'agakiza.

10Imana ntigabitanya ngo yibagire ibikorwa vyanyu n'urukundo mwerekanye ko
mukunze izina ryayo, kuko mwatunga abera, na none mukibatunze.

11Kandi turagomba cane yuko umuntu wese wo muri mwebwe yerekana uwo mwete
nyene w'ivyizigiro vyuzuye gushitsa kw'iherezo;

12kugira ngo ntimube ibinebwe, ariko mwigane abaheshwa n'ukwizera n'ukwihangana
kuragwa ivyasezeranywe.

13Hamwe Imana yasezeranira Aburahamu isezerano, kuko ata we yogira indahiro
ayiruta, yarirahiye

14iti: "Eka no kuguha umugisha nzowuguha, kandi no kukugwiza nzokugwiza."

15Ni ko vyamubereye amaze kwihangana, ahabwa ivyasezeranywe.

16Kuko abantu bagira indahiro uwubaruta, no mu mpari zabo zose indahiro irengeje
ikaba ari yo iziheraheza.

17Ni co catumye Imana, kuko igomba kurushiriza kwereka abaragwa
b'ivyasezeranywe ingene imigabo yayo idahinduka, ishira hagati indahiro kuba
umuhuza;

18kugira ngo bibiri bidahinduka, ivyo Imana itabasha kubesheramwo, biduheshe
kurema cane, twebwe ahashitse mu buhungiro, ni bwo kugumya cane ivyizigiro
vyashizwe imbere yacu.

19Ivyo vyizigiro tubifise nk'ikizirika umutima kigumye, gikomeye, cinjira hirya
y'igitambara gikingiriye ahera cane,

20aho Yesu yatwinjiriye, atwitangiye imbere, amaze guhinduka umuherezi mukuru
w'ibihe bidashira mu buryo bwa Melekisedeki.

## Abaheburayo 7

1Uwo Melekisedeki, umwami w'i Salemu, umuherezi w'Imana Isumbavyose, ni we
yasanganiye Aburahamu, aramuhezagira, hamwe Aburahamu yagaruka, avuye
kunesha abami.

© 2007 Bible Society of Burundi.

2 Ni we kandi Aburahamu yagabanirije ikigira icumi muri vyose, irya mbere asobanurwa, ngo Umwami agororoka, kandi irya kabiri yitwa Umwami w'i Salemu, risobanurwa, ngo Umwami w'amahoro.

3 Nta se, nta nyina, nta mamuko, nta tanguriro ry'imisi canke iherezo ry'ubugingo, ariko agereranywa n'Umwana w'Imana, kandi na ntaryo ahora ari umuherezi.

4 Nuko mwiyumvire uwo muntu ingene ahambaye, uwo Aburahamu sogokuruza mukuru yahaye icacumi co mu minyago iruta iyindi.

5 Kandi mu bana ba Lewi, ivyagezwe bigera yuko abahawe ubuherezi batangisha abantu icacumi, ni bo bavukanyi, naho abo bakomotse mu rura rwa Aburahamu.

6 Ariko wa wundi adaharurwa mu muryango wabo yatangishije Aburahamu ikigira icumi, kandi ahezagira nyene gusezeranywa.

7 Ariko nta wohakana ko uworoshe adahezagirwa n'uwumurengeye.

8 Kandi muri twebwe, abantu bapfa ni bo bahabwa icacumi, ariko muri ya yandi majambo cahawe uwushingirwa intahe ko ariho.

9 Kandi twoshobora kuvuga yuko Lewi, umwe ahabwa icacumi, na we yari yaragitanze muri Aburahamu,

10 kuko yari akiri mu rura rwa sekuruza, hamwe Melekisedeki yamusanganira.

11 None iyaba gutunganywa rwose kwazanywe n'ubuherezi bw'Abalewi,--kuko ku butware bwabwo ari ho ubwo bwoko bwahawe ivyagezwe,--ni iki catumye bigikwiye ko haboneka uwundi muherezi wo mu buryo bwa Melekisedeki, atavugwa mu buryo bwa Aroni?

12 Iyo ubuherezi buhindutse, ivyagezwe ntibibura guhinduka na vyo.

13 Kuko uwavuzweko ivyo, ari uwo mu wundi muryango, utigeze kuvamwo uwakoze igikorwa co ku gicaniro.

14 Birazwi yuko Umwami wacu yakomotse kuri Yuda, kandi uwo muryango Mose nta co yawuvuzeko c'ubuherezi.

15 Ivyo birushiriza guseruka rwose, ko haboneka uwundi muherezi, ahwanye na Melekisedeki,

16 atahawe ubuherezi n'uko vyashinzweho n'ivyagezwe vyo mu buryo bw'abantu, ariko yahawe ubushinzwe n'ubushobozi bw'ubugingo budashobora gukurwaho.

17 Kuko ashingirwa intahe, ngo uri umuherezi ibihe bidashira, Mu buryo bwa Melekisedeki.

18 Nuko rero icagezwe ca mbere cakuweho kubwo inkomezi nke zaco n'ikimazi gike,

19 (kuko ivyagezwe bitigeze kugira ico bihingura rwose) hasubizwaho ivyizigiro bikiruta, biduhesha kwegera Imana.

© 2007 Bible Society of Burundi.

20Kandi ivyo ntivyabaye hatariho indahiro.

21Abalewi bo bahawe ubuherezi ata ndahiro; ariko iyabuhaye uwo yararahiye, imubwiye iti: "Uhoraho ararahiye," ntazokwicuza Ati: "Uri umuherezi ibihe bidashira."

22Uko ni ko Yesu yabaye umwishinzi w'isezerano riruta rya rindi.

23Kandi ba bandi Babaye abaherezi benshi, kuko urupfu rubabuza kwamaho;

24ariko uwo we, kuko yamaho ibihe bidashira, afise ubuherezi budakurwaho.

25Ni co gituma ashobora gukiza rwose abashikira Imana kubwiwe kuko na ntaryo yamaho ngo abasabire.

26Vyari bitubereye kugira umuherezi mukuru ameze atyo, yera, atagira ubugunge, atanduye, yatandukanijwe n'abanyavyaha, yashizwe hejuru y'amajuru,

27atarinda kubanza gutanga ibimazi vy'ivyaha vyiwe uko bukeye, nka ba baherezi bakuru bandi, hanyuma agatanga ivyo abandi bantu. Kuko ivyo yabikoze rimwe, hamwe yitanga.

28Ivyagezwe bishiraho abanyantege nke kuba abaherezi bakuru, ariko ijambo ry'indahiro yaherukiye ivyagezwe rishiraho Umwana w'Imana yahinguwe rwose gushitsa ibihe bidashira.

## Abaheburayo 8

1Mu yo tuvuga, yose arutwa na rimwe, ni iri: dufise umuherezi mukuru ameze atyo, avyagiye i buryo bw'intebe y'Iyihambaye cane yo mw'ijuru,

2akorera ahera, no mw'ihema nyakuri, ryashinzwe n'Uhoraho atari abantu.

3Kuko umuherezi mukuru wese ashirirwaho gushikana amashikanwa no gucumita ibimazi. Ni co gituma wa wundi na we akwiye kugira ico ashikana.

4Iyaba ari mw'isi ntiyobaye umuherezi, kuko hari abandi bashikana amashikanwa nk'uko ivyagezwe bibibwiriza.

5Kandi abo bakorera igishushanyo n'igitutu c'ivyo mw'ijuru, nk'uko Mose yabwiwe n' Imana, agira akoreshe rya hema iti: "Ugire umwete wo gukoresha vyose, ubigereranye n'ikigereranyo werekewe kuri wa musozi."

6Ariko none, igikorwa yahawe kirusha icabo kuba ciza, nk'uko ari umuhuza w'isezerano riruta iryabo, kuko ryashizweho n'ivyasezeranywe biruta ivyo iryabo.

7Iyo rya rindi rya mbere ritabako agasembwa, ntihari hakwiye kuronderwa irindi.

8Kuko yavuze ibagaya iti: "Ehe imisi igira ize," ni jewe Uhoraho ndabivuze, Aho nzosezerana isezerano rishasha n'inzu ya Isirayeli n'umuryango wa Yuda,

© 2007 Bible Society of Burundi.

9 ridahwanye n'isezerano nasezeranye na ba sekuruza, Ku musi nabafata ukuboko nkababakura mu gihugu ca Misiri, Kuko batagumye mw'isezerano ryanje, Nanje sinababababara, ni jewe Uhoraho ndabivuze.

10 Kuko iri ari ryo sezerano nzosezerana n'umuryango w'Abisirayeli Hanyuma y'iyo misi, ni jewe Uhoraho ndabivuze. Nzoshira ivyagezwe vyanje mu bwenge bwabo, No ku mitima yabo kandi ni ho nzovyandika, Nanje nzobabera Imana, Na bo bazoba abantu banje.

11 Kandi ntibazokwigishanya, ngo umuntu wese yigishe mugenzi we, Canke ngo yigishe uwo bavukana ati: "Menya Uhoraho, Kuko bose bazonyimenyera, Uhereye k'uwo hasi ugashitsa k'uwuhambaye muri bo.

12 Kuko nzobagirira ikigongwe ku kugabitanya kwabo, Kandi ivyaha vyabo sinzovyibuka ukundi.

13 Ko avuga ati: "Isezerano rishasha rero irya mbere yarishajishije; ariko igisaza kikaba akaheze kiba kigira gikamangane.

## Abaheburayo 9

1 Nuko isezerano rya mbere na ryo ryarimwo ibirongora ivyo ubuherezi, rifise n'ahera, ariko ho muri iyi si.

2 Kuko hari ihema ryubatswe, mu ryo hino harimwo igiterekwako amatara, imeza n'imitsima yagenewe gushikanirwa Imana yama kuri yo. Iryo ryitwa Ahera.

3 Kandi hirya y'igihuzu ca kabiri gikinze, hari ihema ryitwa Ahera Cane.

4 Harimwo igicaniro co guturirirako imibavu cakozwe mw'izahabu, harimwo n'isandugu y'isezerano yometsweko izahabu impande zose, irimwo urwavya rw'izahabu rurimwo manu, irimwo na ya nkoni ya Aroni yashurika, na vya bisate vy' amabuye vyanditsweko isezerano.

5 Kandi hejuru yayo hari abakerubi b'ubwiza bateye igitutu umutemere wo gutangirako ibimazi; ivyo ntidushobora kubidonda kimwekimwe ubu nyene.

6 Nuko ivyo vyateguwe bityo, abaherezi na ntaryo bama binjira mw'ihema ryo hino, kugira ngo bashitse ivyo ubuherezi.

7 Ariko mu rya kabiri hinjiramwo umuherezi mukuru wenyene, rimwe gusa uko umwaka uheze, ariko ntiyinjiramwo atajanye amaraso yo kwitangira no gutangirira ivyaha vy'abantu batabizi.

8 Mpwemu Yera amenyekanisha atyo yuko inzira ija ahera cane itaribwerekanwe, ihema rya mbere rikiriho.

9 Ni ryo kigereranyo c'igihe ca none, abakurikira ivyagezwe vyaryo bashikana ibimazi bagatanga ibimazi, ariko ku ruhande rw'ijwi ryo mu mutima ntibishobora gutunganya usenga,

© 2007 Bible Society of Burundi.

10kuko ivyo, hamwe n'ivyo ivyo kurya, ivyo kunywa, ivyo kwiyuhagira bo n'ukwoza vy'uburyo bwinshi, ari amabwirizwa yo mu buryo bw'abantu gusa, yashinzwe gushitsa igihe co gutunganywa.

11Ariko Kristo amaze kuza, umuherezi mukuru w'ivyiza bizoza, aca mw'ihema rirusha rya rindi kuba irihambaye n'iritunganye rwose, ritakozwe n'intoke, bisobanurwa ngo ritari iryo mu vyaremwe vy'ubu.

12Kandi amaraso y'impene canke ayo amashuri, si yo yamushikanye ahera cane, ariko yahashikanywe n'amaraso yiwe rimwe gusa, yironkeye ugucungura kw'ibihe bidashira.

13None amaraso y'impene n'ayo impfizi bo n'umunyota w'inka yavutse ubwa mbere umijwe abahumanye, ko vyeza imibiri igahumanuka,

14mbega amaraso ya Kristo, uwo yitanze ku Mana atagira agasembwa, abitewe na Mpwemu ahoraho, ntazorushiriza guhumanura imitima yanyu ngo ibikorwa vy'impfagusa biyivemwo, kugira ngo mubone ingene mukorera Imana nzima?

15Ni co gituma aba umuhuza, ahesha isezerano risha, kugira ngo abahamagawe bahabwe umwandu udashira w'isezerano, bitewe n'uko habayeho urupfu rucungura abacumuye bakiganzwa n'isezerano rya mbere.

16Kuko aho ikete ry'iragi riri hakwiye rwose yuko urupfu rw'uwaraze ruseruka.

17Ikete ry'iragi kibeshwaho n'urupfu rwonyene, kuko ritagira ikimazi uwaraze akiriho.

18Ni co gituma isezerano rya mbere ritasezeranywe ata maraso.

19Mose amaze kubwira abantu bose amabwirizwa yose nk'uko vyagezwe, yakira amaraso y'ishuri n'ayo impene, amazi n'ubwoya bw'intama bujobetswe agahama, yakira na ezobu, acucagira bacucagirisha. Igitabo c'ivyagezwe, bo n'abantu bose,

20arababwira ati: "Aya ni yo maraso y'isezerano Imana yabagereye."

21Kandi ihema n'ibikoresho vyose vy'ivyo ubuherezi, na vyo ni uko abicucagira amaraso.

22Nk'uko ivyagezwe biri, ibintu ni nka vyose vyozwa n'amaraso, kandi hatavuye amaraso ntihaba guharirwa ivyaha.

23Nuko vyari bibereye ko ibigereranyo vy'ivyo mw'ijuru vyozwa n'ivyo bimazi, ariko, ivyo mw'ijuru ubwavyo bikozwa n'ibimazi biruta ivyo.

24Kuko Kristo atinjiye ahera cane hakozwe n'intoke, h'ikigereranyo c'aho ukuri, ariko yinjiye mw'ijuru ubwaho, kugira ngo noneho aduserukire imbere y'amaso y'Imana.

25Kandi ntiyashikanyweyo no kwitanga kenshi, nk'uko umuherezi mukuru yinjira ahera cane uko umwaka uheze, ajanye amaraso atari ayiwe;

© 2007 Bible Society of Burundi.

26kuko iyo biba bityo, aba yari akwiye kubabazwa kenshi uhereye ku kuremwa kw'isi. Yamara ubu yabonetse rimwe kw'iherezo ry'ibihe, kugira ngo akuzeho icaha ukwitanga.

27Kandi nk'uko abantu babikiwe gupfa rimwe, hanyuma yaho hakaza imanza,

28na Kristo ni uko, yamaze gutangwa rimwe ngo yishireko ivyaha vya benshi, azoboneka ubwa kabiri, atazanywe n'ivyaha, abonekere abamwiteze ngo abakize.

## Abaheburayo 10

1Ivyagezwe ko bifise igitutu c'ivyiza bizoza, bidafise ishusho bwite y'ivyo vyiza, nta ho vyoshobora guhingura abegera igicaniro, bibahingurisha ivyo bimazi nyene bahora batanga imyaka n'imyaka.

2Iyo bibishobora, mbega ntibaba barasizeho kubitanga? Kuko abavyitangirira bamaze guhumanurwa rwose rimwe, bataba bakigira imitima irimwo ijwi ribagiriza ivyaha.

3Ariko muri ivyo bimazi hari icibukiriza ivyaha uko umwaka uheze.

4Kuko bidashoboka ko amaraso y'impfizi n'ayo impene akuraho ivyaha.

5Ni co catumye, hamwe yaza mw'isi, avuga Ati: "Ibimazi n'amashikanwa ntiwabigomvye, Ariko wanteguriye umubiri.”

6Ibimazi bituriwe bitagabanije, n'ibimazi vy'ivyaha, ntivyaguhimbaye.

7Mperako ndavuga nti: "Ehe ndaje, (Mu muzingo w'igitabo ni ko binyanditsweko) Nzanywe no gukora ivyo ugomba, Mana.”

8Ahejeje kuvuga haruguru ati: "Ibimazi n'amashikanwa, n'ibimazi bituriwe bitagabanije n'ibimazi vy'ivyaha, ntiwabigomvye kandi ntivyaguhimbaye (ni vyo bitangwa nk'uko bibwirijwe n'ivyagezwe),”

9aherako aravuga ati: "Ehe nzanywe no gukora ivyo ugomba." Akuraho ivya mbere ngo ashinge ivya kabiri.

10Ukwo kugomba kwayo ni kwo kwatumye twezwa, tubiheshwa n'uko umubiri wa Yesu Kristo watanzwe rimwe gusa.

11Kandi umuherezi wese ahagarara uko bukeye akora ivyo ubuherezi, atanga kenshi ivyo bimazi nyene, ata ho vyoshobora gukuraho ivyaha na mba.

12Ariko uwo we, amaze gutanga ikimazi kimwe c'ivyaha kidahinduka, avyagira i buryo bw'Imana,

13aheraho, arorera igihe abansi biwe bazohindurirwa intebe yo musi y'ibirenge vyiwe.

14Kuko ikimazi kimwe ari co yatunganishije rwose abezwa, ukazoshitsa ibihe bidashira.

15Kandi na Mpwemu Yera ni we cabona kidushingira intahe y'ivyo. Amaze kuvuga

© 2007 Bible Society of Burundi.

16ati: "Iri ni ryo sezerano nzosezerana na bo Hanyuma y'iyo misi, ni jewe Uhoraho ndabivuze; Nzoshira ivyagezwe vyanje mu mitima yabo, No mu bwenge bwabo kandi ni ho nzovyandika; arongera

17ati: "Kandi ivyaha vyabo n'ukugabitanya kwabo sinzovyibuka ukundi."

18Ariko, aho ivyo bihariwe, ntihaba hakiriho gutanga ikimazi c'ivyaha.

19Nuko bavukanyi, ko turi n'ubushizi bw'ubwoba bwo gushikanwa ahera cane n'amaraso ya Yesu,

20duciye mu nzira yadutoboreye nshasha iri n'ubugingo, ica mu gihuzu gikinze, bisobanurwa ngo mu mubiri wiwe;

21kandi ko dufise umuherezi akomeye aganza urugo rw'Imana.

22Twegereze dufise imitima y'ukuri, twizeye ata mazinda, imitima yacu yogejwe ngo ivanwemwo ibitwagiriza bibi, imibiri yacu yuhagijwe amazi meza.

23Tugumye ukwatura ivyizigiro vyacu ntikunyiganyige, kuko uwasezeranye ari uwo kwizerwa,

24kandi twiyumviraneko, kugira ngo duterane umwete wo gukundana n'iryo ibikorwa vyiza.

25Ntiduhebe gukoranira hamwe, nk'uko bamwe bagira, ariko duhanurane, kandi uko mubonye wa musi wegereza, murushirize kugenza mutyo.

26Kuko namba dukora ivyaha ibigirankana, kandi tumaze guhabwa kumenya ivyo ukuri, ntihaba hagisigaye ikimazi c'ivyaha,

27ariko haba hasigaye kwitegana ubwoba gutsindwa n'urubanza, no kwitega umuriro w'inkazi, uzorigata abansi b'Imana.

28Uwukengereye ivyagezwe vya Mose, ivyabona bibiri canke bitatu biramwicisha, ata kagongwe.

29Mugira ngo umuntu ntazoba akwiye guhanwa ibirushirije cane, asiribanze Umwana w'Imana, akiyumvira amaraso y'isezerano yamwejeje ko ari igihumane, agacokora Mpwemu w'ubuntu?

30Kuko tuzi uwavuze ati: "Uguhora ni ukwanje, ni jewe nzobasubiriza mu nkoko." Kandi ati: "Uhoraho azocira urubanza abantu biwe.

31Erega birateye ubwoba gukorokera mu maboko y'Imana nzima."

32Ariko mwibuke imisi ya mbere, hamwe mwari mumaze kwakirwa n'umuco, mwihanganira ibisinzikaza vy'indwano nyinshi;

33kimwe, mwacitse akamenyero mutukwa mubabazwa; ikindi, mwafatanije n'abagirirwa batyo.

© 2007 Bible Society of Burundi.

[34]Kuko mwababaranye n'ababoshwe, kandi mwemeye munezerewe kunyagwa ivyo mutunze, mumenya yuko mufise itunga riruta ivyo kuba ryiza, rikamaho.

[35]Nuko ntimute ubushizi bw'ubwoba bwanyu! buri n'impera ikomeye.

[36]Kuko mukwiye kwihangana, kugira ngo ni mwamara gukora ivyo Imana igomba mubone guhabwa ivyasezeranywe.

[37]Kuko hasigaye igihe gito cane, Kandi uwugira aze, azoza, ntazoteba.

[38]Ariko, umugororotsi wanje azobeshwaho n'ukwizera, Naho ni yisokora ntazohimbara umutima wanje.

[39]Ariko tweho ntituri abo mu bisokora bagahona, ariko turi abo mu bizera, ubugingo bwabo bugakizwa.

## Abaheburayo 11

[1]Ukwizera ni ukumenya rwose ivyizigirwa, udakekeranya ngo ntibizoba, kandi ibitabonwa ni kwo kubitumenyesha ko ari ivyo ukuri.

[2]Icatumye aba kera bashingirwa intahe ni uko bari bagufise.

[3]Ukwizera ni kwo kutumenyesha yuko isi yaremwe n'ijambo ry'Imana, ni co catumye ibiboneka bitaremwe mu biseruka.

[4]Ukwizera ni kwo kwatumye Abeli aha Imana ikimazi kiruta ica Kayini, ni kwo kwamuhesheje gushingirwa intahe ko ari umugororotsi, hamwe Imana yashingira intahe ibimazi vyiwe yuko ari vyiza, kandi ni kwo kwatumye n'ubu akivuga, naho yapfuye.

[5]Ukwizera ni kwo kwatumye Henoki ajanwa mw'ijuru, ngo ntabone urupfu, kandi ntiyaboneka, kuko Imana yamujanye. Kuko yashingiwe intahe atarajanwa yuko yahimbaye Imana.

[6]Kandi uwutizera ntibishoboka ko ayihimbara; kuko uwegera Imana akwiye kwizera yuko iriho, igaha impera abayirondera.

[7]Ukwizera ni kwo kwatumye Nowa yubaha, amaze kuburirwa n'Imana ibitaribwaboneke, akabaza ubwato bwo kurokora abo mu nzu yiwe, kandi ni kwo kwamuhaye gutsindisha abari mw'isi, no kuragwa ukugororoka kuzanwa n'ukwizera.

[8]Ukwizera ni kwo kwatumye Aburahamu yumvira Imana imuhamagaye, akaja ahantu yari abikiwe kuragwa. Nuko agenda, atazi iyo aja.

[9]Ukwizera ni kwo kwatumye aba umwimuka mu gihugu yasezeraniwe, nk'ikitari iciwe, akabana mu mahema na Isaka na Yakobo, abaraganywe na we ivyo vyasezeranywe.

[10]Kuko yari arorereye ca gisagara cubatswe kw'umushinge, umugezi n'umwubatsi waco n'Imana.

© 2007 Bible Society of Burundi.

11Ukwizera ni kwo kwatumye na Sara ashobozwa gusama inda, naho yari yaraciye, kuko yiyumviriye yuko iyasezeranye ari iyo kwizerwa.

12Ni co catumye umuntu umwe--kandi uwo yari akaheze--yamukwako n'isinzi nk'inyenyeri zo kw'ijuru, kandi n'abangana n'umusenyi utoharurika uri kw'isesero ry'ikiyaga utoharurika.

13Abo bose bapfuye bacizeye, batarahabwa ivyasezeranywe, ariko barabibona biri kure bakabisanganira, bakemera ko ari akavantara n'ingenzi kw'isi.

14Abavuga batyo baba berekana yuko barondera igihugu cabo bwite.

15Iyo baba barakumbuye ico bavuyemwo, baba barabonye uburyo bwo gusubirayo.

16Ariko noneho barifuza igihugu kirushije ico kuba ciza, ni ico mw'ijuru. Ni co gituma Imana itamaramazwa no kwitwa Imana yabo, kuko yabateguriye igisagara.

17Ukwizera ni kwo kwatumye Aburahamu atanga Isaka ko ikimazi, hamwe yagezwa; mbere uwari yarakiranye igishika amasezerano, yariko aratanga umwana wiwe w'ikinege kw'ikimazi,

18uwo yari yarabariwe ivyiwe, ngo Kuri Isaka ni ho uruvyaro rwawe ruzokwitirirwa;

19kuko yishimiye yuko Imana ishobora no kuzura abapfuye, ni co catumye amugarurirwa nk'uwuzutse.

20Ukwizera ni kwo kwatumye Isaka ahezagira Yakobo na Esawu abahesha imigisha y'ibizoba.

21Ukwizera ni kwo kwatumye Yakobo, aho yagira acikane, ahezagira abana ba Yosefu bompi, agasenga yishimikije ipfundo ry'inkoni yiwe.

22Ukwizera ni kwo kwatumye Yosefu, aho yagira apfe, avuga ivyo kuvayo kw'Abisirayeli, agatanga amategeko y'ivyo amagufa yiwe.

23Ukwizera ni kwo kwatumye Mose, amaze kuvuka, anyegezwa n'abavyeyi biwe amezi atatu, kuko babonye ko ari akana keza, ntibatinya ibwirizwa ry'umwami.

24Ukwizera ni kwo kwatumye Mose, amaze gukura, yanka kwitwa umwana w'umukobwa wa Farawo,

25agahitamwo kugiriranwa nabi n'abantu b'Imana, akabirutisha kumara igihe mu bihimbaro vy'ivyaha.

26Kuko yiyumviriye yuko gucokoranwa na Kristo ari ubutunzi burengeye itunga ryo mu Misiri, kuko yatumbera ingero azogererwa.

27Ukwizera ni kwo kwatumye ava mu Misiri, ntiyatinya ishavu ry'umwami, kuko yashikamye nk'aho abona Iyitaboneka.

28Ukwizera ni kwo kwatumye ashinga Pasika, no kumijagira amaraso, kugira ngo uwuhonya imfura ntabakoreko.

© 2007 Bible Society of Burundi.

29Ukwizera ni kwo kwatumye baca mu Kiyaga Gitukura, nk' abaca ku musozi, ariko Abanyamisiri babigejeje, bararengerwa.

30Ukwizera ni kwo kwatumye impome z'amabuye z'i Yeriko zisenyuka, bamaze kuzikikuza imisi indwi.

31Ukwizera ni kwo kwatumye Rahabu, maraya, ataranduranwa n'abatumviye Imana, kuko yakiranye amahoro abaje gusuma urusaku.

32Mvuge ikindi ki? Kuko igihe condengana ndondoye ivya Gideyoni, ivya Baraki, ivya Samusoni, ivya Yefuta, ivya Dawidi, ivya Samweli n'ivyo abavugishwa n'Imana,

33baheshejwe n'ukwizera gutsinda abami, no gukora ibigororotse, no kuronka ivyasezeranywe, no kuziba iminwa y'intambwe,

34no kuzimya ubukare bw'umuriro, no gukira ubugi bw'inkota, no guhindurwa mu ntege nke ngo zicike inkomezi, no kuba agahebuza mu ntambara, no kunesha ingabo z'abanyamahanga.

35Abagore basubiye kubona abo babuze kuko bazutse, abandi bicishwa amahiri ntibemera gucungurwa, kugira ngo bazohabwe ukuzuka kurushiriza kuba kwiza.

36Abandi bageragereshwa gushinyagurirwa no gukubitwa ibimoko, mbere bashirwa mu migozi no mu mabohero;

37bicishijwe amabuye, bakerewemwo kubiri, barageragejwe, bicishijwe inkota, bayerera bambaye insato z'intama n'izo impene, bari baburaniwe, bababazwa, bagirirwa nabi,

38(isi ntiyari ibabereye ko bayibamwo), bayerera mu bugaragwa no mu misozi no mu masenga yo mu vyobo.

39Abo bose bamaze gushingirwa intahe kubwo ukwizera kwabo, ntibahabwa ivyasezeranywe,

40kuko Imana yabonye kera ikirushiriza kutubera iciza, kugira ngo abo ntibatunganywe rwose tutari kumwe.

## Abaheburayo 12

1Nuko natwe, ko dukikijwe n'igipfungu c'ivyabona kingana gityo, twiyambure ibituremera vyose, n'icaha gikunda kutwizingirako vuba, dusiganirwe ivyo twashizwe imbere twihanganye,

2dutumbereye Yesu wenyene, ni we nyanduruko yo kwizera kandi ni we yagusozereye. Uwo, kubwo umunezero yashizwe imbere, yihanganiye umusaraba, arihangana ntiyagira isoni zawo, avyagira i buryo bw'intebe y'Imana.

3Nuko mushire imitima kuri uwo yihanganiye ibihari bihambaye bityo abanyavyaha bamuharirije, ntimudohoke, ntimwihebure mu mitima yanyu.

4Ntimuragera ku kuvishwa amaraso murwanya icaha,

© 2007 Bible Society of Burundi.

5kandi mwibagiye rya jambo ribahubura ribahanura nk'abana, ngo Mwana wanje,
ntugaye igikangiro c'Uhoraho, Kandi ntiwihebure ni yaguhana.

6Kuko uwo Uhoraho akunda ari we ahana, Kandi akubita uwo yemera wese ko ari
umwana wiwe.

7Ico mukwiye kwihanganira ni ugutozwa indero nziza. Imana ibagirira nk'abana bayo.
Ni umwana ki, adakangirwa na se?

8Ariko namba mudakangirwa nk'ico abandi bose bakorerwa, muri ibivyarwa, ntimuri
ubura bwayo.

9Kandi twari dufise ba data b'imibiri, baradukangira, natwe tukabubaha. None
ntituzorushiriza cane kugororokera Se w'impwemu tugahoraho?

10Kuko ba bandi badukangira imisi mike nk'uko bagomba, ariko we adukangirira
ikigira ikimazi, kugira ngo dusangire na we ukwera kwiwe.

11Nta gikangiro kiboneka ko giteye umunezero ako kanya, atari umubabaro, ariko
hanyuma abamenyerejwe na co kibamira imbuto zizana amahoro zo kugororoka.

12Nuko mugorore amaboko acitse urudendevu, n'amavi aregarega.

13Kandi muharurire ibirenge vyanyu inzira zigororotse, kugira ngo igihinyiza
ntigikondoke, ariko gikire.

14Mukurikire kugiriranira amahoro n'abantu bose, n'ukwezwa, kuko utejejwe
atazoraba Umwami.

15Mwizigame, ntihagire umuntu adashikira ubuntu bw'Imana, kandi ntihagire umuzi
wo kurura umera, ukabahagarika imitima, abenshi bakandura.

16Ntihabeho umushirasoni, canke igihumane nka Esawu, yagurishije ivyo kuba
samuragwa kwiwe ingaburo imwe.

17Kuko muzi yuko hanyuma, hamwe yagomba kuragwa umugisha, atemerewe, kuko
atabonye uburyo bwo kwihana, naho yawurondera cane arira.

18Ntimwegereye umusozi wokorwako, waka umuriro, kandi ntimwegereye umwiza
w'umuzimagiza, uwo umuzitanya, igihuhuta,

19inzumbeti ivuga n'ijwi ry'amajambo; abaryumvise binginga kutabwirwa irindi
jambo.

20Kuko batashoboye kwemera ivyagezwe, ngo Naho coba igitungwa gikoze kuri uwo
musozi bacicishe amabuye.

21Kandi ivyabonetse vyari ibiteye ubwoba, vyatumye Mose avuga ati: "Mfise ubwoba
cane, ndahinda agashitsi.”

22Ariko mwegereye umusozi Siyoni, n'umurwa w'Imana nzima, Yerusalemu ho
mw'ijuru, n'ikoraniro rikuru ry'isinzi ry'abamarayika,

© 2007 Bible Society of Burundi.

23n'ishengero ry'abana b'imfura banditswe mw'ijuru, mwegereye n'Imana umucamanza wa bose n'impwemu z'abagororotsi batunganijwe rwose.

24Mwegereye na Yesu, umuhuza ahesha isezerano rishasha, mwegereye n'amaraso acucagirwa, avuga ivyiza kurusha aya Abeli.

25Mwirinde ntimwanke kwumva Iyiriko iravuga. Ba bandi ko batakize, hamwe banka uwababuririye mw'isi, tweho tuzorushiriza cane kudakira, namba dutera ibitugu Iyituburira iri mw'ijuru.

26Ijwi ryayo ryanyiganyigije isi ico gihe; ariko noneho irasezeranye ati: "Hasigaye rimwe, ngatigitisha, si isi gusa, ariko n'ijuru na ryo.”

27Iryo jambo, ngo Hasigaye rimwe, ryerekana gukurwaho kw'ibinyiganyizwa, kuko ari ivyaremwe, kugira ngo ibitoshobora kunyiganyizwa bigumeho.

28Ni co gituma, kuko twakira ubwami budashobora kunyiganyizwa, dukwiye gukenguruka, kugira ngo tubone ingene dukorera Imana tuyihimbaye, tuyubaha tuyitinya;

29kuko Imana yacu ari umuriro utongora.

## Abaheburayo 13

1Ni hagumeho urukundo rw'abavukanyi.

2Ntimwibagire kugirira neza abashitsi; kuko bamwe bagize batyo bahaye indaro abamarayika batabizi.

3Mwibuke ababoshwe nk'ababohanywe na bo. Mwibuke n'abagirirwa nabi, kuko namwe muri mu mubiri.

4Umubano w'abarongoranye ni wubahwe na bose, kandi uburiri bwabo ntibuhumanywe kuko Imana izocira urubanza inshirasoni n'abasambanyi.

5Gukunda amahera ntikube mu ngeso zanyu; ivyo mufise bibabumbe; kuko ubwayo yavuze iti: "Nta ho nzoguhemukira, nta ho nzoguta.”

6Ni co gituma tuvuga dushize ubwoba tuti: "Uhoraho ni umutabazi wanje, sinzotinya; None umuntu yoshobora kungira iki?”

7Mwibuke ababaganza, bakababwira ijambo ry'Imana; mwitegereje iherezo ry'ingeso zabo, mwigane ukwizera kwabo.

8Yesu Kristo uko yari ari ejo, n'uwu musi ni ko akiri, ni ko azokwama ibihe bidashira.

9Ntimutwarwe n'inyigisho z'uburyo bwinshi zadutse; kuko iciza ari uko umutima ukomezwa n'ubuntu bw'Imana, ntukomezwe n'ivyo kurya, kuko abishize muri vyo bitabagiriye ikimazi.

10Dufise igicaniro, ico abakorera muri rya hema batemererwa kurirako.

© 2007 Bible Society of Burundi.

11Kuko imivyimba ya vya bitungwa, ivyo umuherezi mukuru ajana amaraso yavyo ahera kuba indishi y'ivyaha, itururirwa inyuma y'amahema.

12Ni co catumye na Yesu ababarizwa inyuma y'irembo, kugira ngo yezeshe abantu amaraso yawe.

13Nuko tuve muri ayo mahema, tumusange inyuma yayo, twiremetse ugucokorwa kwiwe.

14Kuko hano tutahafise igisagara kizokwamaho, ariko turondera ikizoza.

15Nuko na ntaryo twame duha Imana ishikanwa ryo gukenguruka tubiheshwa n'uwo, ni co mbuto z'iminwa ishima izina ryayo.

16Kugira neza no kugira ubuntu ntimukavyibagire, kuko ibimazi bimeze bityo ari vyo bihimbara Imana.

17Mwumvire ababaganza, mubagamburukire; kuko ari bo bama bagavye bazigama imitima yanyu, nk'abazobibazwa. Mugenze mutyo kugira ngo babikore banezerewe, batitsa umutima, kuko bimeze bityo ata co vyomarira mwebwe.

18Mudusengere, kuko tuzi tudakekeranya ko turi n'imitima itarimwo ijwi ritwagiriza ikibi, tugomba kugira ingeso nziza muri vyose.

19Kandi ndabinginga nshimitse ngo mudusengere, kugira ngo ntebutswe kubagarukanirwa vuba.

20Imana nyene amahoro, imwe yakura Umwami wacu Yesu mu bapfuye, ari we Mwungere mukuru w'intama, imukujeyo amaraso y'isezerano ry'ibihe bidashira,

21ibe ari yo ibatunganya rwose mu ciza cose, kugira ngo mukore ivyo igomba, ikorera muri twebwe ibishimwa mu maso yayo, kubwa Yesu Kristo. Icubahiro kibe icayo ibihe bitazoshira. Amina.

22Ariko bavukanyi, ndabahanura, mwihanganire iri jambo ribahanura, kuko ndabandikiye amajambo make.

23Mumenye yuko umuvukanyi Timoteyo yarekuwe; ni yaza vuba tuzobonana namwe.

24Muntahirize ababaganza bose, bo n'abera bose. Abo muri Italiya barabatasha.

25Ubuntu bubane namwe mwese. Amina.

© 2007 Bible Society of Burundi.

# Yakobo

## Yakobo 1

1Yakobo, umushumba w'Imana n'uwo Umwami Yesu Kristo, ndabandikiye abo mu
miryango icumi n'ibiri y'abasabagiye. Ni muganuke.

2Mwiyumvire ko ari ivyo kunezererwa rwose, bavukanyi, ni mwagwa mu
bibagerageza bitari bimwe,

3mumenye yuko ibigeza ukwizera kwanyu bitera ukwihangana.

4Ariko ukwihangana gukwiye guhingura igikorwa cakwo, ngo mubone gutungana
rwose muhinguwe; mudahajije na kamwe.

5Ariko asangwa hari uwo muri mwebwe akenye ubwenge, ni abusabe Imana, igabira
bose ititangiriye itama, idaterana imiragwe, azobuhabwa.

6Ariko asabe yizeye, ata co akekeranya, kuko uwukekeranya ameze nk'umupfunda wo
mu kiyaga, utwarwa n'umuyaga, usimbaguritswa.

7Uwo muntu ntiyiyumvire ko ari n'ico azohabwa n'Umwami Imana,

8kuko ari umuntu w'imitima ibiri, ahindagurika mu nzira ziwe zose.”

9Ariko, umuvukanyi w'umufafara ni yirate ko akujijwe,

10umutunzi na we, ni yirate ko acishijwe bugufi, kuko azoyoka nk'amashurwe
y'ivyatsi.

11Kuko izuba rirasa, rizanye indugumba, rikumisha ivyatsi, amashurwe yavyo
agahunguruka, ubwiza bw'ishusho yayo bugashira. Uko ni ko umutunzi azoyonga mu
ngendo ziwe.

12Harahiriwe umuntu yihanganira ibimugerageza, kuko ni yamara kurama azohabwa
igitsibo c'ubugingo, ico Imana yasezeraniye abayikunda.

13Umuntu ni yageragezwa ngo akora ibibi, ntavuge ngo Imana ni yo ingerageje. Kuko
Imana itageragezwa n'ibibi, kandi na yo nta we ibigerageresha.

14Ariko umuntu wese ageragezwa, iyo akwezwe n'ivyo yifuza bikamusuka.

15Maze ukwo kwifuza gutwara inda, kukavyara icaha, icaha kimaze gukura kikavyara
urupfu.

16Ntimuzimire, bavukanyi nkunda.

17Gutanga kwose kwiza n'ingabire yose itunganye rwose biva mw'ijuru, vyururuka
biva kuri Se w'imico, adashobora guhinduka canke kugira igitutu gitewe
n'uguhindagurika.

18Nk'uko yabigabiye ubwayo, yatuvyarishije ijambo ry'ukuri, kugira ngo tube
nk'ivyeze ubwa mbere mu biremwa vyayo.

© 2007 Bible Society of Burundi.

19Ivyo murabizi, bavukanyi nkunda. Yamara umuntu wese ni yihutire kwumva, atebe
kuvuga, atebe kuraka.

20Kuko ishavu ry'umuntu ridakora ivyo ukugororoka kw'Imana.

21Nuko rero, mwiyambure imyanda yose n'ububi busigaye, mwakirane ubugwaneza
ijambo ritewe muri mwebwe, rishobora gukiza ubugingo bwanyu.

22Kandi mube abakora ivyo iryo jambo, ntimube abaryumva gusa, mwibesha.

23Kuko uwumva iryo jambo ntarikore, ameze nk'umuntu yirabiye mu cirore mu maso
hiwe yavukanye.

24Amaze kwiraba, akagenda, uwo mwanya agaca yiyibagira uko asa.

25Ariko, uwitegereza ivyagezwe bitunganye rwose, ari vyo vy'umwidegemvyo,
akabishishikara, atari uwumva akavyibagira, ariko ari uwubikora, ni we azohabwa
umugisha mu vyo akora.

26Umuntu ni yigira ngo n'umunyedini, ntafate ururimi, ariko agahenda umutima wiwe,
idini y'uwo izoba ari iyo ubusa.

27Idini itunganye itagira agasembwa imbere y'Imana Data wa twese, ni ukuraba
impfuvyi n'abapfakazi mu marushwa yabo, no kwirinda ngo ntiwanduzwe n'ivyo isi.

## Yakobo 2

1Bavukanyi, kwizera Umwami wacu Yesu Kristo w'ubwiza ntikubemwo kurobanura
abantu ku cubahiro.

2Mw'ishengero ryanyu ni hinjiramwo umuntu yambaye impeta y'izahabu n'impuzu
zishajije, hakinjira n'umworo yambaye impuzu mbi y'ubuhoma,

3namwe mukitegereza uwambaye impuzu zishajije, mukamubarira muti: "Ni wicare
hano heza;" kandi mukabarira nya mworo muti: "Weho hagarara hariya, canke icara
hambavu y'ibirenge vyanje;"

4none se ntimuba mwisobanuye, mukaba abacamanza biyumvira ibibi?

5Ni mwumve, bavukanyi nkunda. Mbega Imana ntiyatoranirije aboro b'ivyo isi ngo
babe abatunzi mu kwizera, no kuragwa ubwami yasezeraniye abayikunda?

6Ariko mweho mwatetereje umworo. None abatunzi si bo babatwaza amanyama,
bakaba ari bo babakwega babajana mu manza?

7Si bo batyoza izina ryiza mwitirirwa?

8Mugabo namba mushitsa icagezwe c'i bwami nk'uko canditswe, ngo Mukunde
ababanyi banyu nk'uko mwikunda, muba mugize neza.

9Ariko iyo murobanuye abantu ku cubahiro, muba mukoze icaha, mutsinzwe
n'ivyagezwe ko mubaye abanyabicumuro.

© 2007 Bible Society of Burundi.

10Kuko umuntu wese azokwitondera ivyagezwe vyose, agatsitara kuri kimwe, azoba acumuye kuri vyose.

11Uwavuze ati: "Ntugasambane," ni we yavuze ati: "Ntukice." "Nuko rero niyo utasambana ariko ukica, uzoba ucumuye ku vyagezwe.

12Muvuge kandi mukore nk'abagira bacirwe urubanza n'ivyagezwe bizana umwidegemvyo.

13Kuko urubanza rutagirira akagongwe uwutagize akagongwe. Ariko mu rubanza ikigongwe kiratsinda.

14Vyomara iki ga bavukanyi, namba umuntu avuga yuko afise ukwizera, ata bikorwa akora? Mbega ukwo kwizera kwoshobora kumukiza?

15Ni haba hariho uwo muvukana ari we wese yoba yambaye ubusa, agenda aburanirwa ku vyo kurya,

16maze umwe muri mwebwe akamubwira ati: ""Genda amahoro, ususuruke, uhage""; ariko ntimumuhe ivyo umubiri ukena, vyomara iki?

17Ni ko bimeze, n'ukwizera kutari n'ibikorwa, kuri kwonyene, kuba gupfuye.

18Nk'umuntu yovuga ati: ""Weho ufise ukwizera, jeho mfise ibikorwa: nyereka ukwizera kwawe kutagira ibikorwa, nanje ndakwereka ukwizera kwanje guserurwa n'ibikorwa vyanje."" “

19Wemera yuko Imana ari imwe. Ugize neza; abadayimoni na bo nyene baravyemera, bagahinda agashitsi.

20Ariko wa muntu w'imburakimazi we, mbega ugomba kumenya ingene ukwizera kutagira ibikorwa ari uko ubusa?

21Aburahamu sogokuruza, mbega ntiyahinduwe umwere n'ibikorwa, hamwe yari atanze umwana wiwe Isaka ko ishikanwa amutanze ku gicaniro?

22Ntubona yuko ukwizera kwafatanije n'ibikorwa vyiwe, kandi ko ukwizera kwahinguwe rwose n'ibikorwa?

23Kandi icanditswe kirashika, kivuga ngo Aburahamu yizeye Imana, ibimuharurako nk'ukugororoka; kandi yitwa umukunzi w' Imana.

24Murabona yuko ibikorwa ari vyo bihindura umuntu intungane, atari ukwizera kwonyene.

25Kandi na Rahabu maraya ni ko vyabaye. Mbega ntiyahinduwe umwere n'ibikorwa kuko yahaye za ntumwa indaro, akazirangira iyindi nzira?

26Nk'uko umubiri utarimwo impwemu uba upfuye, ni ko ukwizera kutagira ibikorwa kumera, kuba gupfuye.

## Yakobo 3

© 2007 Bible Society of Burundi.

1Bavukanyi, muri mwebwe ntihakabe benshi barondera kuba abigisha. Murazi ko
tuzocirwa urubanza ruruta izo abandi.

2Kuko twese dutsitara muri vyinshi. Umuntu wese adatsitara mu vyo avuga, aba ari
umuntu atunganye rwose, ashobora no kuganza umubiri wiwe wose.

3Iyo twambitse iminyororo mu minwa y'ifarasi, kugira ngo zidukurikire, duhindukiza
n'imibiri yazo zose.

4Kandi raba, n'amato naho yoba maninimanini ate, agakubebwa n'umuyaga uhuhuta
cane, ingafe naho ari ntonto cane ni zo ziyerekeza aho abayatumbereza bagomba.

5N'ururimi ni ko ruri. Ni urugingo rutoya, rukirarira ibikomeye. Raba ishamba, naho
ryoba rinini rite, ridomekwa n'akariro gake.

6Ururimi ni umuriro, ni ikibi kingana n'isi. Ururimi rwashizwe mu ngingo zacu,
ruhumanya umubiri wose, rudomeka ukubaho kwacu kwose, na rwo ruba
rwadometswe na Gehinomu.

7Kuko amoko yose y'ibikoko n'ibiguruka n'ivyikwega n'ivyo mu kiyaga bigundwa
n'abantu, kandi barabigunze;

8ariko, ururimi nta muntu yoshobora kurugunda. Ni ububi bucambagirana, rwuzuye
ubumara bwica.

9Urwo ni rwo dushimisha Umwami Data wa twese, kandi ni rwo tuvumisha abantu,
baremwe mw'ishusho y'Imana.

10Mu kanwa kamwe havamwo umuhezagiro n'umuvumo. Bavukanyi, ivyo ntibikwiye
kumera bityo.

11Mbega iriba ryodudubiza amazi aryoshe n'ayo umururazi mu mbizi imwe?

12Bavukanyi, Mbega umusukoni woshobora kwama elayo, canke umuzabibu
wokwama insukoni? Ni ko amazi y'umunyu adashobora kuvamwo ayaryoshe.

13Ni nde muri mwebwe w'umunyabwenge kandi w'umuhanga? Ni yerekanishe
ibikorwa vyiwe ingeso nziza mu bugwaneza bufatanije n'ubwenge.

14Ariko namba mugira ishari ry'inkazi mu mitima yanyu, mugakunda kwirema ibice,
ntimwirate, mubesha, mucumura ku kuri.

15Ubwo bwenge si bwo bwururuka buvuye mw'ijuru, ariko ubwo isi, ubwo abantu
n'ubwo abadayimoni.

16Kuko aho ishari riri, bo no kwirema ibice, ari ho umuvurungano uri, n'igikorwa kibi
cose.

17Ariko ubwenge buva mw'ijuru, irya mbere buratunganye, kandi n'ubwo amahoro,
burengenga, bukunda kugirwa inama, bwuzuye imbabazi n'imbuto nziza,
ntibukekeranya, ntibugira uburyarya.

18Kandi imbuto zo kugororoka zibibwa mu mahoro n'ababanguranya.

© 2007 Bible Society of Burundi.

## Yakobo 4

1Muri mwebwe intambara ziva hehe, n'imitongano iva hehe? Mbega ntibiva mu bibahimbara birwanira mu ngingo zanyu?

2Murifuza, ariko ntimuhabwa. Murica, mugira ishari, ariko ntimushobora kuronka; murarwana muratabara. Ntimuhabwa kuko mudasaba.

3Murasaba ntimuhabwe, kuko musaba nabi, kugira ngo muvyononere mu bibahimbara.

4Yemwe basambanyi, ntimuzi yuko gucudika n'isi ari ukwankana n'Imana? Nuko umuntu wese agomba kuba incuti y'isi aba yigize umwansi w'Imana.

5Canke mwiyumvira yuko ivyanditswe bivugira ubusa, ngo Uwo Mpwemu yatugerereyemwo atwiyegereza afuha?

6Ariko itanga ubuntu burushirije. Ni co gituma ivuga iti: "Imana irwanya abibona, ariko abicisha bugufi ibaha ubuntu." “

7Nuko mugamburukire Imana, ariko murwanye wa mugarariji, na we azobahunga.

8Mwiyegereze Imana, na yo izobegera. Yemwe banyavyaha, ni mukarabe; yemwe abo imitima ibiri, ni mwiyeze imitima.

9Mubabare, muboroge, murire; ibitwengo vyanyu bihinduke amaborogo, umunezero uhinduke umubabaro.

10Mwicishe bugufi imbere y'Umwami Imana, na yo izobashira hejuru.

11Bavukanyi, ntimuvuganane nabi. Uwuvuga nabi umuvukanyi, canke uwuhinyurira umuvukanyi ku mutima, aba avuze nabi ivyagezwe, ni vyo aba ahinyuye. Ariko iyo uhinyura ivyagezwe, ntuba uvyitondera, uba ubaye umucamanza wavyo.

12Uwushinga ivyagezwe, ari we mucamanza, ni Imwe gusa; ni yo ishobora kurokora no guhonya. Ariko wewe uri iki, uhinyura mugenzawe? “

13Umve rero, yemwe abavuga ngo uwu musi canke ejo tuzoja mu gisagara c'i naka, tuzomarayo umwaka, tudandaze, turonke inyungu;

14ariko mutazi ibizoba ejo. Ubuzima bwanyu ni nk'iki? muri umwuka uboneka umwanya muto, ugahava uyongayonga.

15Ariko mwari mukwiye kuvuga muti: "Umwami wacu ni yabikunda, tuzoramba, kandi tuzokora dutya canke dutya.”

16Yamara none mwirata ukwihayagiza kwanyu; ukwirata kwose bene ukwo ni kubi.

17Nuko uwuzi gukora neza ntabikore, bimubera icaha.

## Yakobo 5

1Ehe rero, yemwe batunzi, ni murire muboroge kuko mugira mufutane.

© 2007 Bible Society of Burundi.

2Ubutunzi bwanyu buraboze, impuzu zanyu ziriwe n'inyenzi;

3izahabu n'ifeza vyanyu binyengeterewe n'ingese; ingese zavyo zizoba icabona co kubagiriza, zizonyengetera imibiri yanyu nk'umuriro. Mwarundanije mu misi y'umuhero.

4Ehe ingero z' abashwabuzi babashwaburiye imirima, izo mwabagunze, zirataka. Amaborogo y'ababashwaburiye yinjiye mu matwi y'Uhoraho Nyeningabo.

5Mwidibamiye mw'isi, mwihaye ibibahimbara: mwaguwe mpishi mu mitima ku musi wo gukekagurwa.

6Mwatsindishije intungane, muramwica, ntiyabarwanya. “

7Nuko bavukanyi, mwihangane mushitse aho umwami Yesu azozira. Ehe umurimyi arorera imirima myiza, ayirindira yihanganye, gushitsa aho izoronkera imvura y' agatasi n'iyo urushana.

8Nuko namwe mwihangane, mureme mu mitima, kuko ukuza kw' Umwami kuri hafi.

9Ntimwidodomberanire, bavukanyi, kugira ngo ntimucirweko iteka. Ehe umucamanza ahagaze ku rugi.

10Abavugishijwe mw'izina ry'Umwami Imana bababere ikigereranyo bavukanyi, co kubabazwa no kwihangana.

11Ehe abihanganye tubita abahirwe. Mwarumvise ukwihangana kwa Yobu, mwabonye ivyo Umwami Imana yaherutse kumugirira, ingene yuzuye imbabazi no kugira ikigongwe.

12Ariko bavukanyi, ikiruta vyose, ntimukarahire. Ntimurahire ijuru, isi canke iyindi ndahiro yose; ariko ijambo ryanyu ribe Ego, ego; Oya, oya; kugira ngo ntimucirirweko urubanza rubatsinda. “

13Muri mwebwe ni haba hariho uwubabaye, ni asenge; namba hariho uwuroraniwe n'umutima, ni aririmbe ishimwe;

14muri mwebwe namba hariho uwurwaye, ni atumeko abashingantahe b'ishengero, baze kumusengera, bamusige amavuta ya elayo mw'izina ry'Umwami wacu.

15Kandi ugusenga gufatanije n'ukwizera kuzokiza umurwayi, Umwami azomuvyura; kandi asanzwe yarakoze ivyaha azobiharirwa.

16Mwaturanire ivyaha vyanyu, musengeranire, kugira ngo mukire indwara. Ugusaba kw'umugororotsi kugira ikimazi kuri vyinshi mu gikorwa cakwo.

17Eliya yari umuntu ameze nkatwe, asaba yinginga ngo imvura ntigwe, imvura imara imyaka itatu n'amezi atandatu itagwa mu gihugu;

18yongera gusaba, ijuru rirekura imvura, isi imeza imirima yayo.

19Bavukanyi, ni hagira umuntu muri mwebwe azimira, akava ku vy'ukuri, uwundi akamuzimurura,

© 2007 Bible Society of Burundi.

[20]mumenye yuko uwuzimuruye umunyavyaha, akamukura mu nzira yiwe
yazimiriyemwo, aba amukirije ubugingo urupfu, kandi aba apfutse ivyaha vyinshi.

© 2007 Bible Society of Burundi.

## Petero Rya Mbere 1

1 Petero, intumwa ya Yesu Kristo, ndabandikiye abatoranijwe b'abanyamahanga bo mu basanzariye i Ponto, i Galatiya, i Kapadokiya, muri Asiya n'i Bituniya,

2 mwatoranirijwe mu kweza kwa Mpwemu nk'uko Imana Data wa twese yabamenye uhereye kera, kugira ngo mwumvire Imana, mumijwe amaraso ya Yesu Kristo. Ubuntu n'amahoro bigwire muri mwebwe.

3 Imana y'Umwami wacu Yesu Kristo, ari yo Se, iragahezagirwa, yatuvyaye ubwa kabiri nk'uko imbabazi zayo nyinshi ziri, kugira ngo tugire ivyizigiro bizima, ituvyaza ukuzuka mu bapfuye kwa Yesu Kristo,

4 ngo tuzokwegukire umugabane utazobora, utanduye, udatituka, mwabikiwe mw'ijuru,

5 mwebwe abazigamwa n'ubushobozi bw'Imana kubwo ukwizera, muzigamirwa agakiza kateguwe kuzohishurwa mu gihe c'iherezo.

6 Ivyo murabinezererwa cane, naho ubu ari igihe gito mubabazwa n'ibibagerageza vyinshi, kuko bitobura kuza;

7 kugira ngo ukwizera kwanyu kugezwe (kandi ukwo kwizera kurusha igiciro izahabu ishira, naho ivugutirwa mu muriro ikakaka) kuzoboneke kuri n'ishimwe n'ubwiza n'icubahiro mu guhishurwa kwa Yesu Kristo.

8 Uwo muramukunda naho mutigeze kumubona; kandi n'ubu, naho mutaramubona, muramwizera, bibatera kunezerwa akanyamuneza k'ubwiza katovugwa,

9 mugahabwa ikizanwa n'ukwizera kwanyu, ni co gakiza k'ubugingo bwanyu.

10 Ivyo ako gakiza, abavugishwa n'Imana, ari bo bavuze ubuntu mwagira muzohabwe, barabirondera, barabisesura,

11 basesa igihe ico ari co n'ibimenyetso vyaryo, cerekanwa na Mpwemu wa Kristo yari muri bo, yavuga yatagura ivyo imibabaro ya Kristo bitaribwabe, n'ivyo ubwiza bw'uburyo bwinshi bwagira buzoyiherukire.

12 Kandi bahishurirwa yuko atari bo bavyikorera, ariko ko ari mwebwe babikorera; ni vyo none mumaze kubarirwa n'abababwiye ubutumwa bwiza, bavugishijwe na Mpwemu Yera yatumwe ava mw'ijuru, kandi ivyo abamarayika bifuza kubirunguruka.

13 Nuko rero mwiteguye gukora mu mitima yanyu, mwirinde ibiboreza, mwizigire rwose ubuntu muzozanirwa mu kuzohishurwa kwa Yesu Kristo.

14 Mumere nk' abana bagamburuka, ntimwishushanye n'ukwifuza kwanyu kwa kera kwo mu gihe c'ukutamenya kwanyu.

15 Ariko nk'uko Iyabahamagaye ari iyera, namwe mube ari ko muba abera mu ngeso zanyu zose.

© 2007 Bible Society of Burundi.

16Kuko vyanditswe, ngo mube abera, kuko nanje ndi uwera.

17Kandi ko Iyo mwambaza muyita So ari yo icira umuntu wese urubanza rukwiranye n'ivyo yakoze itarobanuye ku cubahiro, mumare igihe co kuba abanyamahanga mugende mwubashe Imana kandi muyitinya.

18Muzi yuko ivyo mwacungujwe ngo muve mu ngeso zanyu z'imburakimazi mwarazwe na ba sogokuruza atari ibishira, nk'ifeza canke izahabu,

19ariko mwacungujwe amaraso y'igiciro kinini, nk'ayo umwagazi w'intama utagira agasembwa canke ibara, ni yo ya Kristo.

20Uwo yamenywe n'Imana kera, itanguriro ry'isi ritarashirwaho, ariko yerekanywe kw'iherezo ry'ibihe kubwanyu,

21mwebwe abo yahaye kwizera Imana, ni yo yamuzuye mu bapfuye ikamuha ubwiza. Ni co gituma ukwizera kwanyu n'ivyizigiro vyanyu biba ku Mana.

22Nuko rero, ko mwejesheje imitima kwumvira ukuri, kugira ngo mukunde abavukanyi bitari uruheyiheyi, mukovye mu gukundana bivuye mu mitima.

23Kuko mwavyawe ubwa kabiri, mutavyawe n'imbuto ibora, ariko mwavyawe n'imbuto itabora, mubiheshejwe n'ijambo ry'Imana ririho rigahoraho.

24Kuko, Abafise umubiri bose basa n'ivyatsi, Ubwiza bwabo bwose bumeze nk'amashurwe y'ivyatsi; Ivyatsi biruma, amashurwe agahunguruka,

25Ariko ijambo ry'Uhoraho ryamaho ibihe bidashira. Kandi iryo ni ryo jambo ry'ubutumwa bwiza mwabwiwe.

## Petero Rya Mbere 2

1Nuko rero mwiyambure inzigo yose, ubugunge bwose, uburyarya, ishari no kuvuga abandi nabi kwose,

2mumere nk'inzoya zivutse vuba, mwifuze amata y'umutima adafunguye, kugira ngo abakuze abashitse ku gakiza;

3asangwa mwarayumvirije mukumva yuko Umwami wacu agira neza.

4Nuko mumwegere, ari we buye rifise ubugingo, ryagawe n'abantu, ariko ku Mana ryaratoronijwe, riri n'igiciro,

5mwubakwe nk'amabuye afise ubugingo, kugira ngo mube inzu yo mu buryo bw'impwemu, mugire igikorwa cera c'ubuherezi, ngo Muzotange ibimazi mu buryo bw'impwemu, bishimwa n' Imana kubwa Yesu Kristo.

6Kuko mu vyanditswe harimwo aya majambo, ngo Raba, ndashira i Siyoni ibuye rigumya imfuruka, ryatoranijwe, riri n'igiciro, Kandi uwuryizera ntazomaramazwa.

7Nuko mwebwe abizera ni mwebwe mwagerewe ico giciro, ariko ku banka kwizera, ngo Ibuye abubatsi bagaye, Ni ryo ryahindutse irigumya imfuruka,

© 2007 Bible Society of Burundi.

8Ni ibuye ritsitaza ni urutare rugwisha; kuko batsitara kw'ijambo ry'Imana, bataryumvira; kandi ni co bashiriweho.

9Ariko mweho muri ubwoko bwatoranijwe, muri abaherezi b'ibwami, muri ihanga ryera, abantu bashiriweho kuba inyegu yiharije, kugira ngo mukwize ishimwe ry'Iyabahamagaye, ikabakura mu mwiza, ikabashitsa mu muco wayo utangaje.

10Kera nta bantu mwarimwo, ariko noneho muri abantu b'Imana; kera ntimwaribwagirirwe imbabazi, ariko noneho mwarazigiriwe.

11Abo nkunda, ndabinginga, ko muri abanyamahanga n'ingenzi mwirinde ivyifuzo vy'umubiri birwanya ubugingo;

12mugire ingeso nziza mu mahanga, kugira ngo, no ku vyo babavuga nabi nk'inkozi z'ibibi, ibikorwa vyanyu vyiza babona bizotume bahimbaza Imana ku musi ibagendeye.

13Kubwo Umwami wacu, ni mugamburukire ubukuru bwose bwashizweho n'abantu; ari umwami, kuko ari we gahebuza;

14canke abakuru, kuko ari bo atuma guhana inkozi z'ibibi no gushima inkozi z'ivyiza.

15Kuko ivyo Imana igomba ari uko ugukora neza kwanyu kuba agahomerabunwa ku bantu b'imburabwenge batagira ico bazi,

16ngo mube nk'abidegemvya, ariko atari ukugira umwidegemvyo wanyu umwitwikiro w'inzigo, ariko mube nk'abakozi b'Imana.

17Mwubahe abantu bose; mukunde abavukanyi banyu; mutinye Imana; mwubahe umwami.

18Bakozi, mugamburukire ba shobuja, mububashe rwose, atari ababagirira neza n'ababihaganira gusa, ariko n'abadadika.

19Kuko igishimwa ari uko umuntu, namba ahanuwe n'ijwi ryo mu mutima gukora ivyo Imana igomba, yokwihanganira imibabaro ahowe ubusa.

20Mwokwihanganira gukubitwa ibipfunsi muhowe icaha, mwokwihaya iki? Ariko mwokwihanganira kubabazwa muhowe gukora neza, ivyo ni vyo bishimwa ku Mana.

21Ivyo ni vyo mwahamagariwe, kuko na Kristo yababababarijwe, akabasigarana akarorero, kugira ngo mugere ikirenge mu ciwe.

22We nta caha yakoze, kandi nta bugunge bwabonetse mu kanwa kiwe;

23yaratutswe, ntiyabasubiza; yarababajwe, ntiyabahigira; ariko yiha Iyidaca urwa nkunzi.

24Ubwiwe yikoreye ivyaha vyacu mu mubiri wiwe, abambwe ku giti, kugira ngo dupfuye ku vyaha tubeho ku kugororoka; inguma ziwe ni zo zabakijije.

25Kuko mwari muzimiye nk'intama, ariko noneho mugarutse ku Mwungere w'ubugingo bwanyu, ari we nyene abujejwe.

© 2007 Bible Society of Burundi.

## Petero Rya Mbere 3

1Namwe bagore ni uko, mugamburukire abagabo banyu, kugira ngo, naho bamwe batumvira ijambo ry'Imana, bareshwe n'ingeso nziza z'abagore babo, batagize ijambo bavuze,

2ni babona ingeso zanyu zitunganye zifatanije n'ugutinya.

3Ugushaza kwanyu ntikube ukwo ku rukoba kwo gutsiba umushatsi, ukwo kwambara izahabu canke ukwo kwambara impuzu nziza;

4ariko kube uko umuntu ahishijwe wo mu mutima, ugushaza kudashira, ni kwo mutima w'ubugwaneza utekereje, ni kwo kw'igiciro kinini imbere y'Imana. “

5Ni ko abagore bera bizigira Imana bashaza kera, bagamburukira abagabo babo,

6nk'uko Sara yumvira Aburahamu, akamwita umwami wiwe; namwe muri abana b'uwo, ni mwahora mukora neza, mudaterwa ubwoba n'icobaca ivutu.

7Namwe bagabo ni uko, mubane n'abagore banyu nk'abazi ibibereye, kuko ari nk'ibikoresho bidahwanije namwe inkomezi. Kandi mubahe icubahiro, kuko na bo ari abaraganwa namwe ubuntu bw'ubugingo, kugira ngo ugusenga kwanyu ntikugire ikigutesha.

8Ibisigaye, mwese muhuze umutima, mubabarane, mukundane nk'abavukana, mugiriranire imbabazi, mwicishe bugufi mu mutima;

9ntimugere ikibi ku kindi, canke igitutsi ku kindi; ariko muvyishurane n'umuhezagiro, kuko ico ari co mwahamagariwe, kugira ngo namwe muragwe umugisha.

10Kuko handitswe, " ngo Uwugomba gukunda ubugingo, No kubona imisi myiza, N'abuze ururimi rwiwe, ntiruvuge ikibi, Ni iminwa yiwe ntivuge ivyo uguhendana,

11Kandi azibukire ibibi, akore ivyiza; Arondere amahoro, ayakurikire, kugira ngo ayashikire.

12Kuko inyonga z'Uhoraho ziri ku bagororotsi, N'amatwi yiwe ari ku vyo basenga, Ariko igitsure c'Uhoraho kiri ku bakora ibibi.

13Kandi ni nde yobagirira nabi, ni mwagira ishaka ry'ivyiza?

14Yamara naho mwobabazwa muhowe ukugororoka, mwoba muhiriwe. Ntimuzotinye ivyo babakangisha, ntimuhagarike imitima,

15ariko mwubahe Kristo mu mitima yanyu ko ari we Mwami, muhore mwiteguye kwishura umuntu wese ababajije inyanduruko y'ivyizigiro biri muri mwebwe, ariko muri n'ubugwaneza, mutinya.

16Mufise imitima itarimwo ijwi ribagiriza ikibi, kugira ngo no ku vyo muvugwa nabi, abatuka ingeso zanyu nziza zo muri Kristo bamaramare.

17Ivyoba vyiza ni uko mwobabazwa muhowe gukora ivyiza, ari co Imana igomvye, hako muhorwa gukora ibibi.

© 2007 Bible Society of Burundi.

18 Kuko na Kristo yababajwe rimwe ahorwa ivyaha, umugororotsi yababarijwe abagabitanya, kugira ngo adushikirize Imana; yishwe umubiri, ariko yahinduwe muzima mu buryo bw'impwemu,

19 ni bwo yagiyemwo abarira impwemu ziri mw'ibohero ijambo ry'Imana,

20 ni zo z'abatumviye Imana kera, hamwe ukwihangana kwayo kwari kukirorereye mu misi ya Nowa, bwa bwato bukibazwa; muri bwo harokokeye abantu bakeya, bashika umunani, bakirijwe mu mazi.

21 Ayo ni yo abakiza namwe ubu, mu buryo bw'ikigereranyo c'ukubatizwa, si ugukuraho ubuhoma bwo ku mubiri, ariko ni isezerano ry'umutima utagiriza ikibi usezeranye ku Mana, abakirisha ukuzuka kwa Yesu Kristo,

22 ari i buryo bw' Imana, kuko yagiye mw'ijuru, amaze guhabwa gutwara abamarayika, abanyabubasha n'abanyabushobozi.

## Petero Rya Mbere 4

1 Nuko kuko Kristo yababarijwe mu mubiri, mwitwaze nk'ibirwanisho bene uwo mutima, kuko uwubabarijwe mu mubiri aba amaze kureka icaha,

2 kugira ngo amare imisi isigaye akiri mu mubiri atagikorera ivyifuzo vy'abantu, ariko akora ivyo Imana igomba.

3 Kuko igihe cashize gihagije gukora ivyo abanyamahanga bakunda gukora, no kugendera mu ngeso z'isoni nke, izo kwifuza, kunohorwa n'umuvinyu, kudandahirwa, kurundana aho bateretse n'ibizira vyo gusenga ibigirwamana.

4 Birabatangaza yuko mudafatanya na bo kwirukira mu birenze urugero vy'ubuhumbu, bakabadendereza;

5 mugabo ni bo bazobazwa ivyo n'uwiteguye kuzoca imanza z'abakiriho n'abapfuye.

6 Kuko icatumye abapfuye na bo babariwe ubutumwa bwiza kwari ukugira ngo bacirirwe imanza mu mubiri mu buryo bw'abantu, ariko babeho mu mpwemu mu buryo bw' Imana.

7 Ariko umuhero wa vyose uri hafi. Nuko ni mwitonde rero, mwirinde, kugira ngo mubone uko mushishikara gusenga.

8 Ikiruta vyose, mukovye mu gukundana, kuko urukundo rupfuka ivyaha vyinshi.

9 Muhane indaro mutidodomba.

10 Nk'uko umuntu wese yagabiwe ingabire muzifashishe abandi, nk'uko bibereye ababwiriza beza b'ubuntu bw'Imana bw'uburyo bwinshi.

11 Umuntu iyo avuze, avuge nk'uwubivugishijwe n' Imana; umuntu iyo agaburira abandi, agabure nk'uwufise ubushobozi Imana itanga; kugira ngo Imana iterwe icubahiro muri vyose, kubwa Yesu Kristo, afise icubahiro n'ububasha ibihe bitazoshira. Amina.

© 2007 Bible Society of Burundi.

12 Abo nkunda, umuriro uri hagati yanyu wo kubagerageza ntukabatangaze, nk'aho mubonye akatabonetse.

13 Ariko munezerezwe n'uko mufatanije n'imibabaro ya Kristo, kugira ngo no mu gihe co guhishurwa kw'ubwiza bwiwe muzonezerwe muhimbarwe.

14 Iyo mututswe muhowe izina rya Kristo, muba muhiriwe; kuko Mpwemu w'ubwiza, ari we Mpwemu w'Imana, aba kuri mwebwe.

15 Ntihakagire umuntu wo muri mwebwe ahorwa kuba umwicanyi, igisuma, inkozi y'ikibi canke kwita mu vyo atagezwemwo.

16 Ariko ni hagira uwuhorwa kuba Umukristo, ntamaramare, ariko aheshe Imana icubahiro kubwo iryo zina.

17 Kuko igihe gishitse c'uko urubanza rutangurira mu b'inzu y'Imana, none ko rutanguriye kuri twebwe, iherezo ry' abatumvira ubutumwa bwiza bw' Imana rizomera rite?

18 Kandi ko umugororotsi akizwa agarukiye ku manga, uwutubaha Imana n'umunyavyaha bazoboneka hehe?

19 Nuko rero abababazwa nk'uko Imana igomba ni babitse ubugingo bwabo uwo Muremyi wo kwizigirwa, bakore ivyiza.

## Petero Rya Mbere 5

1 Ndahanura abashingantahe b'ishengero bo muri mwebwe ndabahanura, kuko nanje ndi umushingantahe mugenzi wanyu, kandi ndi icabona c'imibabaro Kristo yababajwe, kandi mfatanije namwe ubwiza buzohishurwa.

2 Muragire ubusho bw'Imana bwo muri mwebwe, mutaburagira nk'abagoberewe, ariko mubikunze, nk'uko Imana igomba. Ntimuburagirishwe no kurondera inyungu mbi, ariko muburagire muvyitangiye.

3 Kandi ntimuragire nk'abatwaza amanyama amasho mwagabanganirijwe, ariko mube ivyitegererezo vy'ubusho.

4 Nuko Umwungere mukuru ni yerekanwa, muzokwambikwa mu mitwe igitsibo c'ubwiza kitazoshira.

5 Namwe abakiri bato, mugamburukire abakurambere. Mwese mukenyere ukwicisha bugufi kugira ngo mukorerane, kuko Imana irwanya abibona, ariko abicisha bugufi ikabaha ubuntu.

6 Nuko mwicishe bugufi muri musi y'ukuboko kw'Imana kw'ubushobozi, kugira ngo izobashire hejuru mu gihe gikwiye.

7 Muyikorere amaganya yanyu yose, kuko ibababara.

8 Mwirinde ibiboreza, mwame mugavye. Umurezi wanyu, ari we wa mugarariji, agendagenda nk'intambwe yivuga, arondera uwo arotsa.

© 2007 Bible Society of Burundi.

9Mumurwanye mufise ukwizera gushikamye, muzi yuko imibabaro ihwanye n'iyanyu ishitswa ku bavukanyi banyu bari mw'isi.

10Kandi Imana igira ubuntu bwose, yabahamagariye ubwiza bwayo budashira muri muri Kristo, ni mwaheza kubabazwa akanya gato, izobahingura rwose ubwayo, izobaremesha, ibahe inkomezi.

11Ububasha bube ubwayo ibihe bitazoshira. Amina.

12Ndabandikiye ikete c'amajambo make, canditswe na Siluwano, umuvukanyi w'umwizigirwa uko niyumvira; ndabahanura nshinga intahe yuko ubwo ari bwo buntu bw' Imana bw'ukuri. Mubuhagararemwo mushikamye.

13Ishengero ry'i Babuloni ry'abatoranijwe nkamwe rirabatasha, bo na Mariko, umwana wanje.

14Muramukanishe kugumbirana kw'urukundo. Amahoro abe muri mwebwe mwese muri muri Kristo.

© 2007 Bible Society of Burundi.

## Petero Rya Kabiri 1

1 Simoni Petero, umukozi wa Yesu Kristo kandi intumwa yiwe, ndabandikiye mwebwe abahawe ukwizera kw'akaburarugero kungana n'ukwacu, muguheshejwe n'ukugororoka kwa Yesu Kristo, ni we Mana yacu n'Umukiza.

2 Ubuntu n'amahoro bigwire muri mwebwe, mubiheshwa no kumenya Imana neza na Yesu Umwami wacu.

3 Kuko ubushobozi bw'ubumana bwayo bwaduhaye ivyo ubugingo no kwubaha Imana vyose, tubiheshwa no kumenya neza uwaduhamagarishije ubwiza bwiwe n'ingeso ziwe nziza.

4 Ivyo vyatumye aduha ivyo yasezeranye vy'akaburarugero, bihambaye cane, kugira ngo bibatere gusangira n'Imana akameremere kayo, mumaze gutoroka muva mw'iborero ryazanywe mw'isi no kwifuza.”

5 Mbere kubwo iyo nyanduruko nyene, ubwanyu ni mugire umwete rwose; ukwizera kwanyu mukwongereko ingeso nziza; ingeso nziza muzongereko ubwenge;

6 ubwenge mubwongereko ukwirinda; ukwirinda mukwongereko ukwihangana; ukwihangana mukwongereko ukwubaha Imana;

7 ukwubaha Imana mukwongereko ugukunda abavukanyi; ugukunda abavukanyi mukwongereko urukundo.

8 Kuko namba mugira ivyo, bikagwira, bituma mutaba abanyabute canke abatunguka ku vyo kumenya neza Umwami wacu Yesu Kristo.

9 Kuko uwutagira ivyo ni mpumyi, abona ibiri hafi gusa, yibagiye umwuhagiro w'ivyaha vyiwe vya kera.

10 Ni co gituma, bavukanyi, mukwiye kurushiriza kugira umwete wo gukomeza ihamagarwa ugutoranywa kwanyu. Ni mwakora ivyo, ntimuzotsitara na gatoya.

11 Kuko ni vyaba bityo, muzohabwa rwose kwinjira mu bwami budashira bwa Yesu Kristo, ni we Mwami n'Umukiza wacu.

12 Ni co gituma imisi yose ntazohengeshanya kubibutsa ivyo, naho mubizi mukaba mushikamye mu kuri kuri muri mwebwe.

13 Ndiyumvira yuko nkwiye kubakangura ndabibutsa, nkiri muri uyu mubiri.

14 Kuko nzi yuko igihe co kwamburwa umubiri wanje kiza kuza gitebutse, nk'uko Umwami wacu Yesu Kristo yamenyesheje.

15 Ariko nzogira umwete, kugira ngo ni namara gupfa muzoshobore kwama mwibuka ivyo.

© 2007 Bible Society of Burundi.

16 Kuko tutakurikiye imigani yaremwe n'akenge, hamwe twabamenyesha ubushobozi bw' Umwami wacu Yesu Kristo no kuzoza kwiwe; ariko n'uko twiboneye n'amaso yacu icubahiro ciwe gihambaye.

17 Kuko yahawe n'Imana Data wa twese ishimwe n'ubwiza, aho ijwi rivuzwe n'ubwiza bukomeye cane ryamushikako, rikavuga riti: "Nguwu Umwana wanje nkunda akampimbara.”

18 Iryo jwi twaryumvise rivuye mw'ijuru, aho twari kumwe na we kuri wa musozi wera.

19 Ariko turafise ijambo ryavugishijwe, ryarakomejwe kurushiriza. Mugira neza ko murishirako umutima, ni nk'itara ryakira ahacuze umwiza, rigakesha ijoro, rikageza aho ikinyenyeri co mu gaturuturu kizokwakira mu mitima yanyu.

20 Irya mbere mukwiye kumenya, ni uko ata jambo ry'abavugishwa n'Imana ryo mu vyanditswe rishobora gusobanurwa nk'uko umuntu avyigombera,

21 kuko ata jambo ry'abavugishwa n'Imana ryazanywe no kugomba kw'umuntu, ariko abantu bavuga ivyava ku Mana, barongowe na Mpwemu Yera.

## Petero Rya Kabiri 2

1 Ariko hari abigira abavugishwa n'Imana kandi, mu bwoko bw'Abisirayeli, nk'uko no muri mwebwe hazobaho abigisha b'ibinyoma, bazozana inyigisho mu mpisho zirema ibice, zitera guhona. Bazokwihakana na Shebuja yabaguze, bihamagarire uguhona gutebutse.

2 Kandi ingeso zabo z'isoni nke benshi bazozikurikira; kubwo ivyo inzira y'ukuri bazoyitukisha.

3 Kandi ukunohokera inyungu kwabo kuzobatera kubungukirako, bababwiye amajambo y'amaremano. Ntibateba gutsindwa n'urubanza kwabo uhereye kera, no guhona kwabo ntiguhunyiza.

4 Kuko, ko Imana itagiriye ikigongwe abamarayika bakoze ivyaha, ariko ikabakororera i kuzimu, ikabashira mu vyobo vy'umwiza, ngo babikirwe gutsindwa n'urubanza;

5 kandi ko itagiriye ikigongwe isi ya kera, ariko igakiza Nowa, umwigisha w'ivyo kugororoka, hamwe n'abandi indwi, aho yazana umwuzure kw'isi y'abatayubaha;

6 kandi ibisagara vy'i Sodomu n'i Gomora, ko yabiciriye urubanza rwo gukomvomvorwa ikabigira umunyota, ikabishiraho kuba akarorero k'abazogenda batubaha Imana,

7 ikarokora Loti, umugororotsi, yababazwa cane n'ingeso z'isoni nke z'abatirinda—

8 kuko uwo mugororotsi, aho yaba muri bo, yagira akabonge uko bukeye mu mutima wiwe ugororoka kubwo ibikorwa vyabo vy'ubugarariji yabona, akumva;--

© 2007 Bible Society of Burundi.

9Umwami Imana arazi gukiza abamwubaha ibibagerageza, no kurindira abagabitanya
mu gihano gushitsa ku musi w'imanza,

10ariko canecane abagenda bakurikira ivyo akameremere kabo, bifuza ibihumanya
bagakengera ababaganza. Nta co batinya, ntibakurwa kw'ijambo, ntibahindishwa
agashitsi no gutuka abanyacubahiro,

11ariko abamarayika naho barusha abo bantu inkomezi n'ubushobozi, ntibarega abo
banyacubahiro ku Mwami Imana, ntibabatuka.

12Ariko abo bantu bameze nk'ibikoko bitagira ubwenge, ibikoko bukoko, vyavukiye
gutegwa no kwicwa, batuka ivyo batazi, uguhonya kwabo kuzobahonya na bo,

13bababazwe n'ibibi, ni zo ngero z'ubukozi bw'ibibi bwabo. Bumva ibibahimbara ari
ukwiririrwa badayangwa, abo ni amarabaga n'agasembwa, badayangishwa n'ivyo
bagunze, bagisangira namwe ivyiza.

14Amaso yabo yuzuye ubusambanyi, ntahaga ivyaha, bahendahenda imitima
idashikamye, bafise imitima yamugariye kunohokera inyungu, ni abana b'ibivume.

15Bataye inzira igororotse, barazimira, bakurikira inzira ya Balamu, umwana wa
Beyori, umwe yakunze ingero zo kugabitanya,

16ariko aharirwa ubugaba bwiwe, hamwe indogoba itazi kuvuga yavuga ijwi nk'iryo
umuntu, ikabuza ibisazi vy'uwo muntu avugishwa n'Imana.

17Abo ni amasoko akamye, kandi ni ibipfungu bitwarwa n'igihuhuta, barindirijwe
umwiza w'umuzitanya.

18Bavuga ibitumvye vy'ubwibone bitagira ico bimaze, bahendahenda abariko
baridohora mu bagenda bazimiye, babahendahendesha ukwifuza kw'umubiri n'isoni
nke.

19Babasezeranira umwidegemvyo, ariko ubwabo ni abaja b'ibihumanye; kuko
icanesheje umuntu kiba kimuhinduye umuja waco.

20Namba kumenya neza Yesu Kristo Umwami wacu n'Umukiza kwarabateye
kudohoka, bakava mu vy'isi bihumanya, maze bakongera kuvyizingiramwo,
bikabanesha, ivyo hanyuma vyabo birusha ivya mbere kuba bibi.

21Icobaye ciza kuri bo, iyaba batigeze kumenya inzira yo kugororoka, hako basubira
inyuma, bamaze kuyimenya, bagata icagezwe cera bahawe.

22Ivyabashitseko ni ivyo uwu mugani w'ukuri ngo imbwa isubiye ku vyo idashwe;
kandi, ngo ingurube yuhagiwe isubiye kwivurunga mu vyondo.

## Petero Rya Kabiri 3

1Abo nkunda, none iki ni co cete ca kabiri ndabandikiye, muri ivyo vyose ndakangura
ivyiyumviro vyanyu bitagira agasembwa, ndabibutsa;

© 2007 Bible Society of Burundi.

2kugira ngo mwibuke amajambo yavuzwe kera n'abavugishwa n'Imana bera, mwibuke n'icagezwe c'Umwami ni we Mukiza, cavuzwe n'abatumwa babatumweko.

3Irya mbere mukwiye kumenya ni uko mu misi y'iherezo hazoza abacokoranyi bacokorana, bakurikira ukwifuza kwabo,

4babaza bati: "Isezerano ryo kuza kwiwe riri hehe se?" Kuko uhereye aho ba sogokuruza basinziririye, vyose bihora uko vyamye, uhereye ku kuremwa kw'isi.

5Kuko biyobagiza ibigirankana yuko kera hari amajuru, n'isi yakuwe mu mazi n'ijambo ry'Imana, rikayirema mu mazi.

6Ivyo vyatumye isi ya kera amazi ayirengera, iratikira.

7Ariko amajuru y'ubu, bo n'isi, iryo jambo ryabizigamye ribirorereza umuriro gushitsa ku musi w'imanza, wo gutikira kw'abatubaha Imana.

8Ariko abo nkunda, iri rimwe mweho ntimuryiyobagize, yuko ku Mwami Imana umusi umwe umeze nk'imyaka igihumbi, n'imyaka igihumbi imeze nk'umusi umwe.

9Umwami Imana ntitebeje isezerano ryayo, uko bamwe biyumvira ko iritevya. Ariko yihanganira mwebwe, ntigomba ko hagira abahona, ariko igomba ko bose bihana.

10Ariko umusi w' Umwami wacu uzoza nk'igisuma, aho amajuru azovaho, hakaba n'ukwasana guhambaye, ivyo itanguriro vyose bigashongeshwa n'ikibengebenge gikaze, isi n'ibikorwa biri muri yo bigatongoka.

11None, ko ivyo vyose bizoshonga bityo, mukwiye kumera mute mu ngeso zera no mu kwubaha Imana,

12no mu kurereka ukuza kw'umusi w'Imana muwuhahamiye, uzotuma amajuru ashongeshwa no gusha, kandi ivyo itanguriro vyose bikayagishwa n'ikibengebenge gikaze?

13Ariko nk'uko yasezeranye, tureretse ijuru rishasha n'isi nshasha, ivyo ukugororoka kuzobamwo.

14Ni co gituma, abo nkunda, kuko mureretse ivyo, mukwiye kugira umwete wo kuzosangwa mu mahoro, mutagira ikirabagu, mutariko umugayo imbere yiwe.

15Mwiyumvire yuko kwihangana kw'Umwami wacu ari agakiza; nk'uko umuvukanyi akundwa Pahulo yabandikiye, uko ubwenge yahawe bungana.

16Yagenjeje atyo mu vyete vyiwe vyose, aho yavuze ivyo; muri vyo harimwo bimwebimwe bigoye itahura, ivyo abantu ataco bazi badakomeye bakavyihindurira ukwabo, nk'uko bagira ivyanditswe bindi, bakihamagarira guhona.

17None mweho, abo nkunda, kuko musanzwe muzi ivyo, mwirinde ngo ntimutwarwe n'ubuzimire bw'abatirinda, mugata ugukomera kwanyu.

18Ariko mukurire mu buntu bwa Yesu Kristo Umwami wacu n'Umukiza, no mu kumumenya. Icubahiro kibe iciwe ubu no gushitsa umusi utagira iherezo. Amina.

© 2007 Bible Society of Burundi.

Yohana Rya Mbere

## Yohana Rya Mbere 1

1Icariho uhereye mu ntango, ico twumvise, ico twabonye n'amaso yacu, ico twitegereje, intoke zacu zikagikorako, ivyo kuri Jambo w'ubugingo—

2kandi ubwo bugingo bwarerekanywe, turabubona, turabushingira intahe, kandi turababarira ivyo ubwo bugingo budashira, bwamanye na Data wa twese, tukabwerekwa—

3ico twabonye tukacumva ni co tubabwira namwe, kugira ngo namwe mufatanye natwe. Kandi natwe dufatanije na Data wa twese n'Umwana wiwe Yesu Kristo.

4Twanditse ivyo kugira ngo umunezero wacu wuzure.

5Ubu ni bwo butumwa twumvise bwavuye kuri we, tukabubabwira, yuko Imana ari umuco, kandi muri yo ko hatagira umwiza na mukeya.

6Tuvuze yuko dufatanije na yo, tukagendera mu mwiza, kuba ari ukubesha, ntituba dukora ivyo ukuri.

7Ariko tugendeye mu muco, nk'uko na yo iri mu muco, tuba dufatanije ubwacu, kandi amaraso ya Yesu Umwana wayo atwoza icaha cose.

8Tuvuze yuko ata caha dufise, tuba twizimiza, ukuri ntikuba kuri muri twebwe.

9Ni twatura ivyaha vyacu, ni yo yo kwizigirwa kandi igororoka, ivyo ni vyo bituma iduharira ivyaha vyacu, ikatwoza ukugabitanya kwose.

10Tuvuze yuko ata caha twakoze, tuba tuyigize umubeshi, kandi n'ijambo ryayo riba ritari muri twebwe.

## Yohana Rya Mbere 2

1Bana banje bato, ndabandikiye ivyo kugira ngo ntimukore icaha. Kandi ni hagira umuntu akora icaha, dufise Umwitsa kuri Data wa twese, ni Yesu Kristo umugororotsi,

2kandi uwo ni we ndishi y'ivyaha vyacu, mugabo si iyo ivyacu twenyene, ariko ni iyo ivyo abari mw'isi bose.

3Iki ni co kitumenyesha ko tumuzi, ni twitondera ivyagezwe na we.

4Uwuvuga ngo Ndamuzi, ntiyitondere ivyagezwe vyiwe, ni umubeshi, ukuri ntikuri muri we.

5Ariko uwitondera ijambo ryiwe wese, ugukunda Imana kuba guhinguwe muri we vy'ukuri. Iki ni co kitumenyesha ko turi muri we;

6uwuvuga ko ahora muri we, akwiye na we kugenda nk'uko uwo yagenda.

© 2007 Bible Society of Burundi.

7Abo nkunda, si icagezwe gishasha ndabandikiye, ariko ni icagezwe ca kera, mwamanye uhereye mu bihe vya kera. Ico cagezwe ca kera ni co rya jambo mwumvise.

8Kandi ndabandikira icagezwe gishasha, kandi ico n'ico ukuri muri we no muri mwebwe. Kuko umwiza uriko urashira, umuco w'ukuri umaze kwaka.

9Uwuvuga ko ari mu muco, akanka umuvukanyi wundi, aba akiri mu mwiza gushika n'ubu.

10Uwukunda umuvukanyi wundi aguma mu muco, nta gitsitaza kiri muri we.

11Ariko uwanka umuvukanyi wundi ari mu mwiza, kandi agendera mu mwiza, ntazi iyo aja, kuko umwiza wamuhumishije amaso.

12Ndabandikiye bana bato, kuko mwahariwe ivyaha vyanyu kubwo izina ryiwe.

13Ndabandikiye ba se, kuko mwamenye uwamyeho mu ntango. Ndabandikiye misore, kuko mwaneshej e wa Mubi. Narabandikiye bana bato, kuko muzi Data wa twese.

14Narabandikiye ba se, kuko muzi uwamyeho mu ntango. Narabandikiye misore, kuko mufise inkomezi, kandi ijambo ry'Imana rikaguma muri mwebwe, kandi mwaneshej e wa Mubi.

15Ntimugakunde isi, canke ibiri mw'isi. Umuntu ni yakunda isi, ugukunda Data wa twese ntikuzoba kuri muri we.

16Kuko ikiri mw'isi cose ari ivyifuzo vy'umubiri, ivyifuzo vy'amaso n'ubwibone bw'ubu bugingo, bitanduruka kuri Data wa twese, ariko vyanduruka mw'isi.

17Kandi isi iriko irashirana n'ivyifuzo vyayo, ariko uwukora ivyo Imana igomba yamaho ibihe bidashira.

18Bana bato, ubu ni igihe c'iherezo; kandi nk'uko mwumvise yuko Antikristo azoza, n'ubu hamaze guseruka ba Antikristo benshi. Ni co gitumye tumenya ko ari igihe c'iherezo.

19Bavuye muri twebwe, ariko ntibari abacu. Iyo baba bari abacu, baba baragumanye natwe; ariko icatumye batuvamwo kwari ukugira ngo bahinyuke bose ko atari abacu.

20Namwe mwarobanujwe amavuta n'Uwera, kandi muzi vyose.

21Sindabandikiye kuko mutazi ukuri, ariko ni uko mukuzi, kandi kuko ata binyoma biva mu kuri.

22Umubeshi ni nde, atari uwuhakana ko Yesu ari Kristo? Ni we Antikristo, ahakana Data wa twese n'Umwana.

23Umuntu wese ahakana Umwana, na Data wa twese ntamufise. Uwemera Umwana afise na Data wa twese.

© 2007 Bible Society of Burundi.

24Mweho ico mwumvise uhereye ku va mu ntango kigume muri mwebwe. Ico mwumvise uhereye mu bihe vya kera ni caguma muri mwebwe, namwe muzoguma mu Mwana no muri Se.

25Iri ni ryo sezerano yadusezeraniye, n'ubugingo budashira.

26Ivyo ni vyo ndabandikiye ku vy' abobazimiza.

27Mweho ukurobanuzwa amavuta mwarobanujwe na we kuguma muri mwebwe, namwe ntimurinda kugira uwo kubigisha, ariko nk'uko ukwo kubarobanura kwiwe kubigisha vyose, kandi ari uko ukuri, atari ibinyoma, kandi nk'uko kwabigishije, ni ko muguma muri we.

28Na none bana bato, mugume muri we, kugira ngo ni yahishurwa tuzoshire ubwoba, ntiduteterwe imbere yiwe aho azozira.

29Ko muzi yuko uwo ari umugororotsi, murazi yuko uwukora ivyo ukugororoka wese yavyawe na we.

## Yohana Rya Mbere 3

1Murabe urukundo uko rungana Data wa twese yatugiriye, ko twitwa abana b'Imana; kandi ni ko turi. Ni co gituma ab'isi batatuzi, kuko batayimenye.

2Abo nkunda, none turi abana b'Imana, ariko uko tuzomera ntikurahishurwa; ico tuzi, n'uko Yesu ni yahishurwa tuzosa na we, kuko tuzomuraba uko ari.

3Kandi umuntu wese amuzigako ivyo, ariyeza, nk'uko uwo ari uwera.

4Umuntu wese akora icaha akora ivyo ubugarariji; kandi icaha ni co mugararizo.

5Kandi murazi yuko uwo yahishuwe kugira ngo akureho ivyaha, kandi ata caha kiri muri we.

6Umuntu wese aguma muri we ntakora ivyaha; uwukora ivyaha wese ntiyamubonye kandi ntiyamumenye."

7Bana bato, ntihakagire uwubazimiza. Uwukora ibigororotse ni we agororoka, nk'uko uwo agororoka.

8Uwukora ivyaha ni uwa wa mugarariji, kuko uhereye mu ntango uwo mugarariji yamye akora ivyaha. Icatumye Umwana w'Imana ahishurwa ngiki; ni ukugira ngo asangangure ibikorwa vy'umwansi.

9Umuntu wese yavyawe n'Imana ntakora ivyaha, kuko imbuto yayo iguma muri we; kandi ntashobora gukora ivyaha, kuko yavyawe n'Imana.

10Iki ni co kimenyekanisha abana b'Imana n'abana b'Umugarariji: uwudakora ibigororotse wese si uwo Imana, canke uwudakunda umuvukanyi wundi.

11Kuko ubu ari bwo butumwa mwumvise uhereye mu bihe vya kera, ngo dukundane;

© 2007 Bible Society of Burundi.

12ntiduse na Kayini, yari uwa wa Mubi, akica murumuna we. Kandi icatumye amwica ni igiki? Ni uko ibikorwa vyiwe vyari bibi, ivya murumuna we bikaba vyiza.

13Bavukanyi, ntimutangazwe n'uko abo isi babanka.

14Twebwe turazi yuko twavuye mu rupfu, twashitse mu bugingo, kuko dukunda abavukanyi bacu. Uwudakundana yama mu rupfu.

15Uwanka umuvukanyi wundi ni umwicanyi; kandi murazi yuko ata mwicanyi yogira ubugingo budashira ngo bugume muri we.

16Iki ni co kitumenyesha urukundo, ni uko uwo yatanze ubugingo bwiwe kubwacu. Natwe dukwiye gutanga ubugingo bwacu kubwa abavukanyi bacu.

17Ariko uwufise ibintu vyo mw'isi, akabona umuvukanyi wundi akenye, akazitira imbabazi ziwe kuri uwo, mbega ugukunda Imana kwoguma muri we gute?

18Bana bato, ntidukundane mu majambo canke ku rurimi, ariko dukundane mu vyo dukora no mu kuri.

19Ico ni co kizotumenyesha ko turi abo ukuri, kandi tuzoshitsa umutima mu nda imbere yayo,

20mu vyo imitima yacu idutsindisha vyose, kuko Imana iruta imitima yacu, kandi izi vyose.

21Abo nkunda, imitima yacu iyo itadutsindishije, turashira ubwoba imbere y'Imana;

22kandi ico dusaba cose tugihabwa na yo, kuko twitondera ivyagezwe vyayo, tugakora ibishimwa imbere yayo.

23Kandi icagezwe cayo ngiki: ni uko twizera izina ry'Umwana wayo Yesu Kristo, tugakundana, nk'uko yatubariye.

24Kandi uwitondera ivyagezwe vyayo aguma muri yo, na yo ikaguma muri we. Kandi ikitumenyesha yuko iguma muri twebwe, ni Mpwemu yaduhaye.

## Yohana Rya Mbere 4

1Abo nkunda, ntimwemere impwemu zose, ariko mugerageze impwemu ko zavuye ku Mana. Kuko abigira abavugishwa n' Imana benshi badutse mw'isi.

2Iki abe ari co kibamenyesha Mpwemu w'Imana, impwemu yose yatura Yesu Kristo ko yaje afise umubiri, iba yavuye ku Mana,

3kandi impwemu yose itatura Yesu ityo ntiba yavuye ku Mana; kandi iyo mpwemu iba ari iya Antikristo, iyo mwumvise ko izoza, kandi n'ubu iramaze gushika mw'isi.

4Mweho muri abava ku Mana, bana bato, kandi ba bandi mwarabanesheje; kuko Uwuri muri mwebwe aruta uwuri mu b'isi.

5Abo ni abava mw'isi, ni co gituma bavuga ivyo isi, abo isi bakabumvira.

© 2007 Bible Society of Burundi.

6Tweho turi abava ku Mana; uwuzi Imana aratwumvira; uwutava ku Mana ntatwumvira. Ico ni co kitumenyesha impwemu y'ukuri n'impwemu izimiza.

7Abo nkunda, dukundane; kuko urukundo ruva ku Mana. Umuntu wese akundana yavyawe n' Imana, kandi azi Imana.

8Uwudakundana, ntazi Imana, kuko Imana ari urukundo.

9Iki ni co caseruye urukundo rw'Imana muri twebwe, ni uko Imana yarungitse Umwana wayo w'ikinege mw'isi, kugira ngo duheshwe ubugingo na we.

10Iki ni co kirimwo urukundo, si uko twebwe twakunze Imana, ariko n'uko ari yo yadukunze, igatuma Umwana wayo kuba indishi y'ivyaha vyacu.

11Abo nkunda, ko Imana yadukunze ityo, natwe dukwiye gukundana.

12Nta wigeze kubona Imana. Dukundanye, Imana iguma muri twebwe, no kuyikunda kuba guhinguwe muri twebwe.

13Iki ni co kitumenyesha yuko tuguma muri yo, na yo ikaguma muri twebwe, ni uko yaduhaye kuri Mpwemu wayo.

14Natwe twarabibonye, tubishingira intahe, yuko Data wa twese yatumye Umwana wiwe kuba Umukiza w'isi yose.

15Uwatura yuko Yesu ari Umwana w'Imana, Imana iguma muri we, na we akaguma mu Mana.

16Natwe twamenye kandi twizeye urukundo Imana idufitiye. Imana ni urukundo; kandi uwuguma mu rukundo aguma mu Mana, Imana ikaguma muri we.

17Ico ni co kimaze guhingura urukundo muri twebwe, kugira ngo tuzoshire ubwoba ku musi w'imanza, kuko uko ari, ari ko turi muri iyi si.

18Nta bwoba buba mu rukundo, ariko urukundo ruhinguwe rwirukana ubwoba, kuko ubwoba bugendana n'igihano, kandi uwufise ubwoba ntarahingurirwa mu rukundo.

19Twebwe tugira urukundo, kuko ari yo yabanje kudukunda.

20Umuntu ni yavuga ati: "Ndakunda Imana," akanka umuvukanyi wundi, aba ari umubeshi, kuko uwudakunda umuvukanyi yabonye ntashobora gukunda Imana atabonye.

21Kandi dufise iki cagezwe kuri yo, ngo Uwukunda Imana akunde n'uwundi muvukanyi.

## Yohana Rya Mbere 5

1Uwemera wese yuko Yesu ari Kristo, ni we yavyawe n'Imana. Kandi umuntu wese akunda uwo Muvyeyi, akunda n'uwavyawe na we.

2Iki ni co kitumenyesha yuko dukunda abana b' Imana, ni twakunda Imana tugakora ivyagezwe vyayo.

© 2007 Bible Society of Burundi.

3Kuko ugukunda Imana ari uku, ni uko twitondera ivyagezwe vyayo; kandi ivyagezwe vyayo ntibigora.

4Kuko icavyawe n'Imana cose kinesha isi; iyi ni yo ntsinzi yacu yatsinze isi, ni ukwizera kwacu.

5Ni nde atsinda isi, atari uwizera yuko Yesu ari Umwana w'Imana?

6Ni we Yesu Kristo yaje agaca mu mazi no mu maraso; si mu mazi yonyene, ariko ni mu mazi no mu maraso.

7Kandi Mpwemu ni we abishingira intahe, kuko Mpwemu ari ukuri.

8Kuko ibishingantahe ari bitatu, Mpwemu, amazi n'amaraso; kandi ivyo bitatu bihuriza hamwe.

9Ko twemera intahe ishinzwe n'abantu, intahe y'Imana yo ni agaheta; kuko intahe y'Imana ari iyi, ari uko yashingiye intahe ivyo Umwana wayo.

10Uwizera Umwana w' Imana ni we afise iyo ntahe muri we; uwutizera Imana aba ayigize umubeshi, kuko atemeye intahe Imana yashingiye Umwana wayo.

11Kandi iyo ntahe ni iyi: ni uko Imana yaduhaye ubugingo budashira, kandi ubwo bugingo ko buri mu Mwana wayo.

12Uwufise Umwana wayo ni we afise ubwo bugingo; uwudafise Umwana w' Imana ntafise ubwo bugingo.

13Ivyo ndabibandikiye, mwebwe mwizeye izina ry'Umwana w' Imana, kugira ngo mumenye yuko mufise ubugingo budashira.

14Kandi ubu ni bwo bushizi bw'ubwoba dufise kuri yo, ni uko iyo dusavye ikintu cose gihwanye n'ivyo igomba, itwumva.

15Kandi ko tuzi yuko yumva ico dusavye cose, bitumenyesha yuko duhawe ivyo tuyisavye.

16Umuntu ni yabona umuvukanyi wundi akora icaha kitari ico kumwicisha, asenge, azohesha ubugingo abakoze ivyaha bitari ivyo kubicisha. Hari icaha co kwicisha; ico si co mvuze ko asengera.

17Kugabitanya kwose ni icaha, kandi hari icaha kitari ico kwicisha.

18Turazi yuko umuntu wese avyawe n'Imana adakora ivyaha, ariko umwe yavyarwa n'Imana aramuzigama, kandi wa Mubi ntamukorako.

19Turazi yuko turi abo Imana, kandi isi yose iri muri wa Mubi.

20Kandi tuzi yuko Umwana w'Imana yaje, akaduha ubwenge ngo tumenye Iyo ukuri, kandi turi mu Y'ukuri, turi mu Mwana wayo Yesu Kristo. Iyo ni yo Mana nyakuri, n'ubugingo budashira.

21Bana bato, mwirinde ibigirwamana.

© 2007 Bible Society of Burundi.

## Yohana Rya Kabiri 1

1Jewe umushingantahe ndakwandikiye, mwubahwa watoranijwe, mwe n'abana bawe abo nkunda vy'ukuri; kandi si jewe jenyene ndabakunda, ariko n'abazi ukuri bose barabakunda,

2kubwo ukuri kuba muri twebwe, kukazogumana natwe ibihe bidashira.

3Ubuntu, imbabazi n'amahoro, biva ku Mana Data wa twese no kuri Yesu Kristo, Umwana wa Data wa twese, bizobana natwe mu vyo ukuri no mu rukundo.

4Ndanezerewe cane, kuko nasanze bamwe mu bana bawe bagendera mu kuri, nk'uko twagezwe na Data wa twese.

5Kandi none ndakwinginga mwubahwa, si nk'uwukwandikira icagezwe gishasha, ariko ni ico twamanye uhereye mu bihe vya kera, ngo dukundane.

6Uru ni rwo rukundo, ni uko tugenda dukurikira ivyagezwe na we. Ico ni co cagezwe, nk'uko mwumvise uhereye mu bihe vya kera, ko mukigenderamwo. " “

7Kuko abayobeza benshi baserutse bakaja mw'isi, batemera ko Yesu Kristo yaje afise umubiri. Uwumeze atyo, ni we ayobeza, kandi ni we Antikristo.

8Mwiyubare, ntimuhombe ivyo ibikorwa mwakoze, ariko ngo muhabwe ingero itagabanije.

9Umuntu wese arenga ku nyigisho, akagenda kure mu bindi, ntagume mu vyo Kristo yigishije, ntafise Imana. Uwuguma mu vyo yigishije ni we afise Data wa twese n'Umwana.

10Ni hagira umuntu aza i wanyu, akaza atazanye iyo nyigisho, ntimuzomwakire mu nzu zanyu, kandi ntimuzomuhe ikaze;

11kuko uwuzomuha ikaze azoba afatanije na we mu bikorwa vyiwe bibi.

12Naho nari mfise vyinshi vyo kubandikira, singomvye kuvyandikisha ubwino ku rupapuro; ariko nizigiye kuzoza i wanyu ngo tuvugane imbonankubone kugira ngo umunezero wanyu ube uwuzuye.

13Abana b'umuvukanyi wawe yatoranijwe baragutasha. "

© 2007 Bible Society of Burundi.

# Yohana Rya Gatatu

## Yohana Rya Gatatu 1

1Jewe umushingantahe ndakwandikiye Gayo umukundwa, nkunda vy'ukuri.

2Mukundwa, ndagusengera ngo umererwe neza muri vyose, uhore uhangamye, nk'uko ubugingo bwawe bumerewe neza.

3Kuko nanezerewe cane hamwe abavukanyi baza bagashingira intahe ukuri kwawe, yuko ugendera mu kuri.

4Nta wundi munezero mfise uruta uwu, kwumva ko abana banje bagendera mu kuri.

5Mukundwa, wama uyoboka mu vyo ukorera abavukanyi vyose, kandi ari abanyamahanga;

6na bo bashingiye intahe urukundo rwawe mu maso y'ishengero. Kandi uzoba ugize neza ni wabarungika, uko bibereye ab' Imana.

7Kuko bavuye i wabo kubwo Izina rya Yesu, ata co batse abanyamahanga. “

8Nuko twebwe dukwiye kwakira neza abameze batyo, kugira ngo dufatanye n'ukuri gukora igikorwa.

9Hari ico nandikiye ishengero, ariko Diyotirefe, akunda kwishira imbere muri bo, ntatwemera.

10Ni co gituma, ni naza, nzobibutsa ivyo akora, atuvuga amajambo mabi y'ubupfu, kandi ntagarukiza kuri ivyo gusa, ariko ubwiwe ntiyakira abavukanyi, n'ababigomba arababuza, akabaca mw'ishengero. “

11Mukundwa, ntukigane ikibi, ariko wigane iciza. Uwukora ivyiza ni we w'Imana; uwukora ibibi ntiyabonye Imana.

12Demetiriyo ashingirwa intahe na bose, kandi n'ukuri ubwakwo kurayimushingira, natwe nyene turayimushingira. Nawe urazi ko ivyo dushingira intahe ari ivyo ukuri.

13Nari mfise vyinshi vyo kukwandikira, mugabo singomba kukwandikishiriza ubwino n'ikaramu;

14ariko nizigiye ko nzokubona vuba, tukazovugana imbonankubone.

15Amahoro abane nawe. Abakunzi barakuganutsa. Untahirize abakunzi, uko amazina yabo angana. "

© 2007 Bible Society of Burundi.

# Yuda

## Yuda 1

1 Yuda, umukozi wa Yesu Kristo, kandi mwene nyina wa Yakobo, ndabandikiye abahamagawe, bakundwa kuko muri mu Mana Data wa twese, mukazigamirwa Yesu Kristo.

2 Imbabazi, amahoro n'urukundo bigwire muri mwebwe.

3 Bakundwa, hamwe nashiruka umwete wo kubandikira ivyo agakiza dusangiye, nari numvise ikingobera kubandikira ivyo kubahanura kurwanira cane ukwizera abera bahawe rimwe gusa.

4 Kuko hariho bamwe babajemwo binyegeteza, bandikiwe kera gucirwako urwo rubanza, batubaha Imana, bahindura ubuntu bw'Imana yacu isoni nke, bakihakana Yesu Kristo, ni we wenyene Databuja n'Umwami wacu. “

5 Ndagomba kubibutsa, naho vyose musanzwe mubizi, yuko Umwami Imana, imaze gukiza bwa bwoko ikabukura mu gihugu ca Misiri, hanyuma yahoneje abatizeye.

6 N'abamarayika batagumye mu bukuru bwabo, ariko bataye ahantu habo, ibarindira kuzocirwa urubanza rwo ku musi uhambaye, bari mu minyororo idashira no mu mwiza.

7 Kandi n'abantu b'i Sodomu n'i Gomora bo n'ibisagara vyari bihereranye na ho, kuko bitanze bakiha ubusambanyi nka ba bandi, n'ubusambanyi bw'ishano, ubwo imibiri itaremewe, ivyo bisagara vyashiriweho kuba akarorero, bibabazwa n'igihano c'umuriro utazima.

8 Ariko na barya nyene bahwanye na bo, inzozi zabo zibatera kwonona imibiri yabo, no gukengera ukuganzwa no gutuka abanyacubahiro.

9 Ariko na Mikayeli, umumarayika mukuru, hamwe yatongana na wa Mugarariji, aharira na we bapfa umuvyimba wa Mose, ntiyubahutse kumuhinyura ngo amucokore, ariko yamubwiye ati: "Uhoraho aguhane.”

10 Ariko abo bantu batuka ivyo batazi; kandi ni ivyo bamenyeshwa n'akameremere kabo, nk'uko ibikoko bimeze bitagira ubwenge, na vyo nyene baravyiyononesha.

11 Bazobona ibara, kuko bajanye inzira ya Kayini, bakiroha mu buzimire bwa Balamu kubwo amaronko, bagahonera mu mugararizo wa Kora.

12 Abo ni impanuka mw'isangira ryanyu ry'urukundo, iyo basangira namwe ivyiza; ni abungere biragira ubwabo ata dusoni; ni ibicu bitagira amazi, bizungagizwa hose n'umuyaga; n'ibiti birumvye bitama, vyapfuye kabiri, vyaranduranywe n'imizi;

13 ni imipfunda yo mu kiyaga isuriranya, babimba ifuro ry'ibiteye isoni vyabo; ni inyenyeri ziyerera zibikiwe umwiza w'umuzimagiza ibihe bidashira.

© 2007 Bible Society of Burundi.

14 Kandi Henoki, ni we yagira indwi uhereye kuri Adamu, yavugishijwe n'Imana ivyabo ati: "Ehe Uhoraho yazananye n'isinzi ry'abera biwe,

15 kugira ngo acire bose imanza, no kwemeza abatubaha Imana bose ko batsinzwe ku bikorwa vyose vyo kutubaha Imana bakoze batayubaha, n'amajambo yose akomeye abanyavyaha batubaha Imana bavuze bayirwanya."

16 Abo ni abidodomba n'abanyamwikomo bagenda bakurikira ukwifuza kwabo, akanwa kabo kavuga amajambo yuzuyemwo ukwirarira, bubahira abantu kubakuramwo amaronko.

17 Ariko mweho, bakundwa, mwibuke amajambo yavuzwe kera n'intumwa z'Umwami wacu Yesu Kristo;

18 ko bababwiye bati: "Mu gihe c'iherezo hazoboneka abacokoranyi bagenda bakurikira ukwifuza kwabo kwo kutubaha Imana."

19 Abo ni bo bazana kwirema ibice; ni abantu gusa, ntibafise Mpwemu.

20 Ariko mweho, bakundwa, mwiyubake ku kwizera kwanyu kwera cane, musengere muri Mpwemu Yera,

21 mwizigamire mu rukundo rw'Imana, mwiteze imbabazi z' Umwami wacu Yesu Kristo zibashitsa ku bugingo budashira.

22 Ababahaririza mubahanure.

23 Abandi mubakize, mubokore mu muriro; abandi mubagirire ikigongwe mutinya, mwanke n'impuzu itewe amarabaga n'umubiri.

24 Ariko, Iyishobora kubazigama ngo ntimutsitare, no kubahagarika imbere y'ubwiza bwayo mudafise agasembwa munezerewe cane,

25 ni yo Mana imwe yonyene, Umukiza wacu yadukirishije Yesu Kristo Umwami wacu, ubwiza, icubahiro n'inganji n'ububasha bibe ivyayo, uhereye kera hose, gushika n'ubu, ugashitsa ibihe bidashira. Amina.

© 2007 Bible Society of Burundi.

# Intangamarara

## Intangamarara 1

1Uguhishura kwa Yesu Kristo, ukwo yahawe n'Imana ngo yereke abakozi biwe ibigira bibeho vuba, agatuma umumarayika wiwe akabimenyesha umukozi wiwe Yohana,

2yashingiye intahe ivyo yabonye vyose, ni vyo jambo ry'Imana, no gushinga intahe kwa Yesu Kristo.

3Harahiriwe uwusoma, harahiriwe n'abumva amajambo y'uku kuvugishwa n'Imana, bakitondera ivyanditswe muri yo; kuko igihe kiri hafi.

4Jewe Yohana ndabandikiye mwebwe abo mu mashengero indwi yo muri Asiya. Ndabipfurije ubuntu n'amahoro biva kuri Iyo iriho, yamyeho kandi igira ize, biva no ku Mpwemu indwi ziri imbere y'intebe yayo,

5no kuri Yesu Kristo, icabona co kwizigirwa, imfura y'abari barapfuye, uwuganza abami bo mw'isi. Umwe adukunda, yatubohoje ivyaha vyacu amaraso yiwe,

6akaduhindura ubwami, no kuba abaherezi b'Imana yiwe, ni yo Se; icubahiro n'inganji bibe ivyiwe ibihe bitazoshira. Amina.

7Ehe arazanana n'ibicu, kandi ijisho ryose rizomwibonera, n'abamucumise bazomubona; kandi amoko yose yo mw'isi azoborogeshwa na we. Ni ko biri. Amina.

8Jewe ndi Alufa na Omega, ni ko Umwami Imana avuze, iriho, kandi yamyeho, kandi igira ize, ni yo ishobora vyose.

9Jewe Yohana, umwana wa So, musangiye amarushwa, ubwami n'ukwihangana biri muri Yesu, nari ku kizinga Patimo co mu kiyaga, bampora ijambo ry'Imana no gushingira intahe Yesu.

10Ku musi w'Imana nari muri Mpwemu, numva inyuma yanje ijwi rirenga nk'iryo inzumbeti,

11rivuga riti: "Ico ubona ucandike mu gitabo, ukirungikire amashengero indwi, ukirungike muri Efeso, i Simuruna, i Perugamo, i Tuwatira, i Sarudi, i Filadelufiya n'i Lawodikiya.”

12Mpindukira kuraba ijwi tuvuganye; mpindukiye mbona ibiterekwako amatara indwi vy'izahabu,

13kandi hagati y'ivyo biterekwako amatara mbona uwusa n'Umwana w'umuntu, yambaye imyambaro ishika ku birenge, yambaye mu gikiriza umukaba w'izahabu.

14Kandi umutwe wiwe n'umushatsi vyera nk'ubwoya bw'intama y'umwero, canke nk'ipampa ryera cane n'amaso yiwe yasa n'imbeya z'umuriro;

15ibirenge vyiwe vyasa n'umuringa w'umwakaka, utukujwe n'umuriro; n'ijwi ryiwe ryari rimeze nk'iryo amazi menshi asuma,

© 2007 Bible Society of Burundi.

16kandi mu kuboko kwiwe kw'i buryo yarafise inyenyeri indwi, mu kanwa kiwe havamwo inkota ikarishe, mu nyonga hiwe hari hameze nk'izuba iyo ryatse mu nkomezi zaryo zose.

17Ndamubonye, nikubita imbere y'ibirenge vyiwe nk'uwupfuye; maze anshirako ukuboko kw'i buryo ati: "Ntutinye; jewe ndi uwa mbere kandi ndi uwo iherezo,

18kandi ndi muzima; nari narapfuye, kandi raba mpora ndi muzima ibihe bitazoshira, mfise impfunguzo z'urupfu n'izo i kuzimu."

19Nuko wandike ivyo ubonye, ibiriho n'ibizoba hanyuma y'ivyo.

20Ibanga ry'inyenyeri indwi izo umbonanye mu kuboko kwanje kw'i buryo n'ivyo ibiterekwako amatara indwi vy'izahabu, inyenyeri indwi ni zo bamarayika b'ayo mashengero indwi, ibiterekwako amatara indwi na vyo ni vyo mashengero indwi.

## Intangamarara 2

1Andikira umumarayika w'Ishengero ryo muri Efeso uti: "Uwufashe inyenyeri indwi mu kuboko kw'i buryo, akagendera hagati y'ibiterekwako amatara indwi vy'izahabu, aravuga ibi,

2ngo Ndazi ibikorwa vyawe n'ubutame bwawe n'ukwihangana, kandi yuko udashobora kwirengagiza ababi, ariko wagenzuye abiyita intumwa kandi atari zo, usanga ni abanyabinyoma.

3Kandi ugira ukwihangana, wirengagije ivyo ugirirwa kubwo izina ryanje, ntiwacobogora.

4Ariko mfise ico ndakugayako, yuko waretse urukundo rwawe rwa mbere.

5Nuko ni wibuke aho wavuye ukagwa; wihane, ukore ibikorwa nk'ivya mbere. Ni yo utagira utyo, nzokuzako nkure igiterekwako itara cawe ahantu haco, kiretse wihanye.

6Ariko ico ufise ni uko wanka ibikorwa vy'Abanikolayiti, ivyo nanje nanka.

7Uwuri n'ugutwi ni yumve ico Mpwemu abwira amashengero. Uwunesha, nzomuha kurya ku vyamye ku giti c'ubugingo kiri muri Paradiso y'Imana."

8Kandi wandikire umumarayika w'Ishengero ry'i Simuruna uti: "Uwa mbere kandi uwo iherezo, uwari yarapfuye kandi akaba muzima, aravuga ibi,

9ngo Ndazi amarushwa yawe n'ubworo bwawe (yamara uri umutunzi), n'ibitutsi vy'abiyita Abayuda, atari bo, ariko ari isengero ry'Abayuda ya Satani.

10Ntutinye ivyo ugira ubabazwe. Ehe uwo mugarariji agira ashire bamwe muri mwebwe mw'ibohero kugira ngo mugeragezwe, kandi muzogira amarushwa imisi icumi. Wame uyoboka gushitsa ku gupfa, nanje nzoguha igitsibo c'ubugingo.

11Uwuri n'ugutwi ni yumve ico Mpwemu abwira amashengero. Uwunesha nta co urupfu rwa kabiri ruzomugira."

© 2007 Bible Society of Burundi.

12Kandi wandikire umumarayika w'Ishengero ry'i Perugamo uti: "Uwufise inkota
ikarishe aravuga ibi,

13ngo Ndazi aho uba, ko ari ho umurwa wa Satani uri; kandi wumiye kw'izina ryanje,
ntiwihakanye kunyizera no mu misi ya Antipa, icabona canje, n'umugororotsi wanje,
yiciwe i wanyu, aho Satani aba.

14Ariko mfise ivyo ndakugayako bike, kuko i wanyu uhafise abakomeza inyigisho za
Balamu, yigishije Balaki gushira igitsitaza imbere y'Abisirayeli, kugira ngo barye
ivyashikaniwe ibigirwamana, bashegure.

15Ni ko nawe, ufise abakomeza inyigisho z'Abanikolayiti nk'uko nyene.

16Nuko rero ni wihane. Ni yo utihana nzokuzako vuba, kandi abo nzobarwanya,
ndabakubite inkota yo mu kanwa kanje.

17Uwuri n'ugutwi ni yumve ico Mpwemu abwira amashengero. Uwunesha nzomuha
kuri manu yanyegejwe, kandi nzomuha ibuye ryera, kuri iryo buye handitsweko izina
rishasha, nta muntu arizi, atari uwuzorihabwa.

18Kandi wandikire umumarayika w'Ishengero ry'i Tuwatira uti: "Umwana w'Imana,
afise amaso asa n'imbeya z'umuriro, ibirenge vyiwe bisa n'umuringa w'umwakaka,
aravuga ibi,

19ngo Ndazi ibikorwa vyawe, urukundo rwawe, ukwizera kwawe, ingene ushitsa
ibango ryawe, ukwihangana kwawe, kandi ko ibikorwa vyawe vyo hanyuma biruta
ivya mbere kuba vyinshi."

20Ariko mfise ico ndakugayako, yuko ukundira urya mugore Yezebeli, yiyita
uwuvugishwa n'Imana, akigisha akazimiza abakozi banje, kugira ngo bashegure barye
ivyashikaniwe ibigirwamana.

21Kandi namuhaye uburyo bwo kwihana, ntiyakunda kwihana ngo areke ugushegura
kwiwe.

22Ehe ndamutsinda ku buriri, ndarungikira abasambana na we amarushwa menshi, ni
batihana ibikorwa vyiwe.

23Kandi n'abana biwe nzobicisha urupfu, kandi amashengero yose azomenya yuko ari
jewe nsesa mu mishaha no mu mitima, kandi nzokwishura umuntu wese wo muri
mwebwe ibihwanye n'ivyo mwakoze.

24Ariko mweho abasigaye mu b'i Tuwatira, abadafise iyo nyigisho mwese, batamenye
ivyo ba bandi bita ivyo mu kuzimu vya Satani, ndababwira nti: "Nta wundi mutwaro
ndabikoreza atari uwu;

25ko mwumira ku co mufise mugashitsa aho nzozira."

26Uwunesha akitondera ibikorwa vyanje agashitsa kw'iherezo, nzomuha ububasha
bwo kuganza amahanga.

© 2007 Bible Society of Burundi.

27Azoyaragiza inkoni y'icuma, nk'uko bamenagura inzavya z'ibumba; nk'uko nanje nahawe na Data.

28Kandi nzomuha ikinyenyeri co mu gaturuturu.

29Uwuri n'ugutwi, ni yumve ico Mpwemu abwira amashengero.

## Intangamarara 3

1Kandi wandikire umumarayika w'Ishengero ry'i Sarudi uti: "Uwufise Impwemu indwi z' Imana n'inyenyeri indwi," aravuga ibi, ngo Ndazi ibikorwa vyawe, ko uvugwa ko uri muzima, ariko uri uwapfuye.

2Gira ube maso, ukomeze ibisigaye bigira bipfe; kuko ata bikorwa vyawe nabonye bisozerewe imbere y'Imana yanje.

3Ni wibuke rero ingene wakiriye kandi wumvise, uvyitondere, wihane. Nuko rero ni yo utaba maso, nzoza nk'igisuma, nawe ntuzomenya igihe nzokwubira.

4Ariko ufise amazina makeya y'abo i Sarudi batanduje impuzu zabo; ni bo bazogendana nanje bambaye impuzu zera, kuko bibabereye.

5Uwunesha uko ni kwo azokwambikwa impuzu zera, kandi sinzosibanganya izina ryiwe mu gitabo c'ubugingo na mba, kandi nzokwatura izina ryiwe imbere ya Data, n'imbere y'abamarayika biwe.

6Uwuri n'ugutwi, ni yumve ico Mpwemu abwira amashengero.

7Wandikire umumarayika w'Ishengero ry'i Filadelufiya uti: "Uwera, uwo ukuri, uwufise urupfunguruzo rwa Dawidi, uwugurura ntihagire uwugara, kandi uwugara ntihagire uwugurura, aravuga ibi,

8ngo Ndazi ibikorwa vyawe (ehe nashize imbere yawe urugi rwuguruye, nta wushobora kurwugara) yuko ufise ubushobozi buke, witondeye ijambo ryanje, ntiwihakanye izina ryanje.

9Ehe ndaguhaye bamwe bo mu rusengero rw'Abayuda ba Satani, biyita Abayuda, atari bo, ariko babesha; ehe nzobagobera kuza, bikubite imbere y'ibirenge vyawe, bamenye yuko nagukunze.

10Ko witondeye ijambo ryo kwihangana kwanje, nanje nzokurinda igihe co kugerageza, kigira kize mu bihugu vyose, kugerageza ababa mw'isi.

11Ngira nze vuba; wumire ku co ufise, ntihagire uwugutwara igitsibo cawe.

12Uwunesha nzomugira inkingi yo mu rusengero rw'Imana yanje, kandi ntazosohoka ukundi, nanje nzomwandikako izina ry'Imana yanje, n'iryo umurwa w'Imana yanje, ni wo Yerusalemu mushasha, wururuka uvuye mw'ijuru ku Mana yanje, kandi nzomwandikako izina ryanje rishasha.

13Uwuri n'ugutwi ni yumve ico Mpwemu abwira amashengero."

© 2007 Bible Society of Burundi.

14Wandikire umumarayika w'Ishengero ry'i Lawodikiya uti: "Uwiyita Amina, icabona co kwizigirwa kandi c'ukuri, inkomoko y'ivyaremwe n'Imana, aravuga ibi,

15ngo Ndazi ibikorwa vyawe, yuko udakonje kandi ntubire. Icompa ugakonja canke ukabira!

16Nuko rero kuko uri akazuyazi, udakonje ntubire, ngira ndakudahwe.

17Kuko uvuga uti: "Ndi umukire ndatunze kandi nta co nkenye; ntumenye yuko ari wewe mutindi, wafutanye, uri umworo, uri impumyi, ugenda gusa;

18ndakugira inama, ungureko izahabu yatyorowe n'umuriro, ubone kuba umutunzi; ungureko n'impuzu zera, ubone kwambara, isoni z'ubwambure bwawe ntizigaragare; kandi ungureko n'umuti wo gusiga ku maso, ubone guhumuka.

19Abo nkunda bose ndabakankamira, nkabakangira; nuko gira umwete, wihane.

20Ehe mpagaze ku rugi, ndaramukije. Umuntu ni yumva ijwi ryanje, akugurura umwango, ndinjira i we, dusangire.

21Uwunesha, nzomuha kwicarana nanje ku ntebe yanje y'ubwami, nk'uko nanje nanesheje nkicarana na Data ku ntebe yiwe.

22Uwuri n'ugutwi, ni yumve ico Mpwemu abwira amashengero."

## Intangamarara 4

1Hanyuma y'ivyo ndavye mbona mw'ijuru umwango wuguruye, kandi rya jwi nabanje kwumva rivugana nanje ari nk'iryo inzumbeti, rirambwira riti: "Duga uze hano, nkwereke ibikwiye kuzobaho hanyuma y'ivyo.”

2Ako kanya nja muri Mpwemu; kandi mbona intebe iteretse mw'ijuru, mbona n'Uwuyivyagiyeko.

3Uwari avyagiye yasa n'akabuye k'igiciro kitwa yasipi n'akitwa sarudiyo; kandi umunywamazi wari ukikije iyo ntebe, usa n'akitwa simaragido.

4Iyo ntebe yari ikikijwe n'izindi ntebe mirongo ibiri na zine; kuri izo ntebe mbona abakuru mirongo ibiri na bane bazicayeko, bambaye impuzu zera, no mu mitwe yabo hari ibitsibo vy'izahabu.

5Kandi kuri ya ntebe y'ubwami hava imiravyo, amajwi n'imituragaro, kandi imuri indwi z'umuriro zakira imbere y'iyo ntebe, ni zo Mpwemu indwi z'Imana.

6Kandi imbere y'iyo ntebe hari nk'ikiyaga c'ibirahuri, gisa n'urubona; kandi hagati aharabana n'iyo ntebe no kuyikikuza hari ibinyabugingo bine vyuzuye amaso imbere n'inyuma.

7Ikinyabugingo ca mbere casa n'intambwe, ica kabiri casa n'inyana, ica gatatu cari gifise mu maso hasa n'aho umuntu, ica kane casa n'inkona iguruka.

© 2007 Bible Society of Burundi.

8Ivyo binyabugingo bine bifise amababa atandatutandatu, kandi vyuzuye amaso impande zose n'imbere mu nda; ntibiruhuka ku murango no mw'ijoro, vyama bivuga biti: "Uwera, Uwera, Uwera, ni we Mwami Imana Ishobora vyose, yamyeho, kandi iriho, kandi agira aze.”

9Kandi iyo vya binyabugingo bihaye uguhimbazwa, icubahiro n'ishimwe Iyivyagiye kuri ya ntebe, ni yo Ibaho ibihe bitazoshira,

10ba bakuru mirongo ibiri na bane baca bikubita imbere y'Iyivyagiye kuri iyo ntebe, bagasenga Iyibaho ibihe bitazoshira, bagaterera ibitsibo vyabo imbere y'iyo ntebe, bavuga

11bati: "Mwami wacu, Mana yacu, birakubereye guhabwa uguhimbazwa, icubahiro n'ububasha, kuko ari wewe waremye vyose; icatumye bibaho kandi icatumye biremwa, ni uko wabigomvye."

## Intangamarara 5

1Mbona igitabo mu kuboko kw'i buryo kw'Iyivyagiye kuri ya ntebe, canditse imbere n'inyuma, gihomeshejwe udushashara indwi, tukimatanije duteweko ikimenyetso.

2Mbona umumarayika w'inkomezi nyinshi asemereza ijwi rirenga ati: "Ni nde bibereye ko azingurura kirya gitabo ngo amene ibikimatanije?”

3Ntihagira uwo mw'ijuru canke uwo kw'isi canke uwo i kuzimu ashobora kuzingurura ico gitabo canke kukiraba.

4Nanje ndizwa cane n'uko hatabonetse uwubereye kuzingurura ico gitabo canke kukiraba.

5Umwe muri ba bakuru arambarira ati: "Nta co urira; ehe Intambwe yo mu muryango wa Yuda, Umunago wo ku gishitsi ca Dawidi, yaranesheje, ngo azingurure igitabo, amene ibikimatanije indwi.”

6Mbona hagati ya ya ntebe na vya binyabugingo bine no hagati ya ba bakuru, Umwagazi w'Intama ahagaze, asa n'uwishwe, afise amahembe indwi n'amaso indwi, ni vyo Mpwemu indwi z'Imana, zatumwe kwama zija mw'isi yose.

7Araza, agikura mu kuboko kw'i buryo kw'Iyivyagiye kuri ya ntebe.

8Amaze gufata ico gitabo, vya binyabugingo bine na ba bakuru mirongo ibiri na bane baca bikubita imbere y'uwo Mwagazi, bose bafise inanga, n'inzavya z'izahabu zuzuye imibavu, ni yo gusenga kw'abera.

9Baririmba indirimbo nshasha bati: "Birakubereye gufata igitabo, no kumena ibikimatanije, kuko wishwe, ugacungurira Imana abo mu miryango yose, mu ndimi zose, mu moko yose no mu mahanga yose, ubacunguje amaraso yawe,

10ukabahindura ubwami bw'Imana yacu no kuba abaherezi bayo, kandi bazoba abami mw'isi.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

11Ndaraba, numva ijwi ry'abamarayika benshi bakikije ya ntebe na vya binyabugingo
na ba bakuru; igitigiri cabo cari amasinzi n'amasinzi, ni ibihumbi ni ibihumbi.

12Bavuga n'ijwi rirenga bati: "Umwagazi yishwe abereye guhabwa ububasha,
ubutunzi, ubwitonzi, ubushobozi, icubahiro, guhimbazwa n'umugisha.

13Kandi icaremwe cose co mw'ijuru, mw'isi, i kuzimu, hejuru y'ikiyaga n'ibiri muri
vyo vyose, numva bivuga biti: "Iyivyagiye ku ntebe bo n'Umwagazi w'Intama,
umugisha, icubahiro, ishimwe n'ububasha bibe ivyabo no guhimbazwa ibihe
bitazoshira.”

14Kandi vya binyabugingo bine biravuga biti: "Amina." Bano bakuru bikubita hasi,
barasenga.

## Intangamarara 6

1Mbona Umwagazi w'Intama amena kamwe muri twa dushashara indwi tumatanije ca
gitabo; numva kimwe muri vya binyabugingo bine kivuga nk'ijwi ry'inkuba kiti:
"Ngwino.”

2Mbona ifarasi y'umwero, kandi uwuyicayeko yarafise umuheto, ahabwa igitsibo,
agenda anesha, kandi ngo yame anesha.

3Kandi amenye aka kabiri kamatanije ca gitabo, numva ikigira kabiri mu
binyabugingo kiti: "Ngwino.”

4Haza iyindi farasi y'akagajo, uwuyicayeko ahabwa gukura amahoro mw'isi, ngo
bicane; kandi ahabwa inkota ndende.

5Kandi amenye aka gatatu kamatanije ca gitabo, numva ikigira gatatu mu
binyabugingo kiti: "Ngwino." Mbona ifarasi y' agafyiri; kandi uwuyicayeko yarafise
umunzane mu minwe.

6Numva hagati y'ivyo binyabugingo bine nk'ijwi rivuga riti: "Ingero imwe y'ingano
n'idenariyo-idenariyo, n'ingero zitatu za sayiri ni idenariyo-idenariyo; ariko amavuta
n'umuvinyu ntugire ico ubikorako.

7Kandi amenye aka kane kamatanije ico gitabo, numva ijwi ry'ikigira kane mu
binyabugingo kiti: "Ngwino.”

8Mbona ifarasi ibenjutse; kandi uwuyicayeko yitwa Rupfu, Kuzimu na we
aramukurikira; bahabwa ububasha ku kigira kane c'isi, ngo babicishe inkota, inzara,
urupfu n'ibikoko vyo kw'isi.

9Kandi amenye aka gatanu kamatanije ico gitabo, mbona musi y'igicaniro impwemu
z'abishwe babahorwa ijambo ry'Imana no gushinga intahe bari bafise.

10Batakambisha ijwi rirenga bati: "Databuja wera w'ukuri, uzogeza ryari kudaca
imanza no kudahora abari mw'isi amaraso yacu?

© 2007 Bible Society of Burundi.

11 Umuntu wese muri bo ahabwa imyambaro yera, babarirwa kumara iyindi misi baruhuka, gushitsa aho igitigiri c'abakozi bagenzi babo n'abavukanyi babo, bagira bicwe nka bo, kizoshikira.

12 Kandi mbona amena aka gatandatu kamatanije ico gitabo, isi iratigita cane; izuba ririrabura nk'igunira ry'ubwoya; ukwezi kwose guhinduka nk'amaraso.

13 Inyenyeri zo kw'ijuru zikorokera hasi, nk'uko umusukoni uzungagizwa n'igihuhuta ugahungurura insukoni zawo zitararunguriza.

14 Ijuru ririzinga, nk'umuzingo w'igitabo kizinzwe; imisozi yose n'ibizinga vyo mu kiyaga vyose bikurwa ahantu havyo.

15 Abami bo mw'isi, abaganwa n'abakuru b'intwazangabo z'abasoda, abatunzi, abanyenkomezi, abakozi bose n'abidegemvya bose binyegeza mu masenga no mu bitandara vyo ku misozi;

16 babarira imisozi n'ibitandara bati: "Ni mutugweko, muduhishe amaso y'Iyivyagiye kuri irya ntebe n'ishavu ry'Umwagazi w'Intama;

17 kuko umusi uhambaye w'ishavu ryabo ushitse, kandi ni nde ashobora guhagarara?"

## Intangamarara 7

1 Hanyuma y'ivyo, mbona abamarayika bane bahagaze ku mfuruka zine z'isi, bafashe imiyaga ine yo kw'isi, kugira ngo ntihagire umuyaga uhuha kw'isi canke ku kiyaga canke ku giti cose.

2 Kandi mbona umumarayika wundi aduga, ava mu buseruko, afise ikidomesho c' Imana nzima, asemerera n'ijwi rirenga, abarira ba bamarayika bane bahawe kwonona isi n'ikiyaga

3 ati: "Ntimugire ico mugira isi canke ikiyaga canke ibiti, tutaradoma ikimenyetso mu ruhanga rw'abakozi b'Imana yacu."

4 Numva igitigiri c'abadomweko ikimenyetso, ngo ni ibihumbi ijana na mirongo ine na bine, abadomweko ikimenyetso bo mu bwoko bwose bw'Abisirayeli.

5 Abo mu muryango wa Yuda bakidomweko ni ibihumbi icumi na bibiri. Abo mu bwoko bwa Reyubeni ni ibihumbi icumi na bibiri. Abo mu bwoko bwa Gadi ni ibihumbi icumi na bibiri.

6 Abo mu bwoko bwa Asheri ni ibihumbi icumi na bibiri. Abo mu bwoko bwa Nafutali ni ibihumbi icumi na bibiri. Abo mu bwoko bwa Manase ni ibihumbi icumi na bibiri.

7 Abo mu bwoko bwa Simeyoni ni ibihumbi icumi na bibiri. Abo mu bwoko bwa Lewi ni ibihumbi icumi na bibiri. Abo mu bwoko bwa Isakari ni ibihumbi icumi na bibiri.

8 Abo mu bwoko bwa Zebuloni ni ibihumbi icumi na bibiri. Abo mu bwoko bwa Yosefu ni ibihumbi icumi na bibiri. Abo mu bwoko bwa Benyamini badomweko ikimenyetso ni ibihumbi icumi na bibiri.

© 2007 Bible Society of Burundi.

9Hanyuma y'ivyo mbona ishengero ryinshi, ata woshobora kuriharura, bo mu mahanga yose, imiryango yose, mu moko yose no mu ndimi zose, bahagaze imbere y'iyo ntebe n'imbere y'Umwagazi w'Intama, bambaye imyambaro yera, bari n'amashami y'ibigazi mu minwe.

10Basemerera n'ijwi rirenga bati: "Agakiza ni ako Imana yacu ivyagiye kuri irya ntebe kandi ni ako Umwagazi w'Intama."

11Abamarayika bose bari bahagaze bakikije ino ntebe, bakikije na ba bakuru na vya binyabugingo, bikubita hasi bubamye imbere y'intebe, basenga Imana

12bati: "Amina, umugisha, guhimbazwa, ubwenge, ishimwe, icubahiro, ububasha n'ubushobozi ni ivyo Imana yacu ibihe bitazoshira. Amina."

13Umwe muri ba bakuru arambaza ati: "Aba bambaye imyambaro yera ni ba nde, kandi bavuye hehe?"

14Ndamwishura nti: "Mugenzi, ni wewe wobimenya." Arambwira ati: "Aba ni abavuye muri wa mubabaro mwinshi, kandi bamesuye imvune zabo bazezesha amaraso ya wa Mwagazi.

15Ni co gituma baba imbere y'intebe y'Imana, bakayikorera mu rusengero rwayo ku murango no mw'ijoro. Kandi Iyivyagiye kuri irya ntebe izosanza ihema ryayo hejuru yabo.

16Ntibazoba bakigira inzara ukundi, kandi ntibazoba bakigira inyota ukundi, kandi izuba ntirizobarabika canke indugumba yose,

17kuko wa Mwagazi ari hagati aharabana n'iyo ntebe, azobaragira, kandi azobashora ku masoko y'amazi y'ubugingo; kandi Imana izohanagura amosozi yose ku maso yabo.

## Intangamarara 8

1Kandi amenye ikigira indwi kimatanije ico gitabo, haba agacerere mw'ijuru nk'igice c'isaha.

2Mbona abamarayika indwi bama bahagarara imbere y'Imana bahabwa inzumbeti indwi.

3Haza uwundi mumarayika, ahagarara ku gicaniro, afise icotero c'izahabu, ahabwa imibavu myinshi ngo ayishire ku gusenga kw'abera bose kuri ku gicaniro c'izahabu kiri imbere y'iyo ntebe.

4Umwotsi w'umubavu uva mu kuboko kw'umumarayika upfundukana n'ugusenga kw'abera imbere y'Imana.

5Umumarayika ajana icotero, acuzuza umuriro wo ku gicaniro, ashiburira mw'isi, habaho imituragaro, amajwi, imiravyo no gutigita kw'isi.

6Ba bamarayika indwi bafise inzumbeti indwi bagabiriza kuzivuza.

© 2007 Bible Society of Burundi.

7Uwa mbere aravuza. Haza urubura n'umuriro bivanze n'amaraso, bishiburirwa mw'isi ica gatatu c'isi kirasha, ica gatatu c'ibiti kirasha, ivyatsi bibisi vyose birasha.

8Umumarayika wa kabiri aravuza. Ikimeze nk'igisozi kinini caka umuriro gishiburirwa mu kiyaga; ica gatatu c'ikiyaga gihinduka amaraso;

9ica gatatu c'ivyaremwe vyo mu kiyaga bifise ubugingo kirapfa; ica gatatu c'amato kirahona.

10Umumarayika wa gatatu aravuza, inyenyeri nini iva mw'ijuru iratibuka, yaka nk'urumuri, itibukira ku kigira gatatu c'inzuzi no ku masoko.

11Iyo nyenyeri yitwa Mururazi. Ica gatatu c'amazi gihinduka umururazi, abantu benshi bicwa n'ayo mazi, kuko yarurishijwe.

12Umumarayika wa kane aravuza. Ica gatatu c'izuba, icagatatu c'ukwezi n'ica gatatu c'inyenyeri birakubitwa, kugira ngo ica gatatu cavyo gicure umwiza, ica gatatu co mu bihe vy'umurango nticakirwe, no mw'ijoro ni uko.

13Ndaraba, numva inkukuma iguruka hejuru mu kirere, ivuga n'ijwi rirenga iti: "Ibara, ibara, ibara riza kubonwa n'abari mw'isi kubwo ayandi majwi y'inzumbeti z'abamarayika batatu bahava bavuza."

## Intangamarara 9

1Umumarayika wa gatanu aravuza. Mbona inyenyeri itibukiye mw'isi ivuye kw'ijuru; ihabwa urupfunguruzo rw'imanga yo mu kuzimu.

2Yugurura iyo manga yo mu kuzimu, ipfundukamwo umwotsi nk'uwo itanure rinini, izuba n'ikirere bicurishwa umwiza n'umwotsi wo muri iyo manga.

3Mu mwotsi havamwo inzige, zija mw'isi, zihabwa ububasha bwo gukora ivyo sikorupiyo zo kw'isi zibasha gukora.

4Zibwirwa kutagira ico zigira ivyatsi vyo kw'isi canke ikintu cose kibisi canke igiti cose, atari abantu batadomweko ikimenyetso c'Imana mu ruhanga rwabo.

5Zihabwa kutabica, ariko zihabwa kubababaza amezi atanu. Kandi ukubabaza kwazo kumeze nk'ukwa sikorupiyo iyo iriye umuntu.

6Muri iyo misi abantu bazoba barondera urupfu, ariko ntibazorubona na gatoya; bazoba bifuza gupfa, urupfu rubahunge.

7Kandi ishusho y'izo nzige yasa n'iyo amafarasi ateguriwe kuja mu ntambara, zari zambaye mu mitwe ibitsibo bisa n'izahabu, mu maso hazo hasa n'aho abantu.

8Kandi zari zifise ubwoya bumeze nk'umushatsi w'abagore, amenyo yazo yari nk'ayo intambwe.

9Kandi zari zifise ibikingira ibikiriza, bimeze nk'ivyuma, uguhinda kw'amababa yazo kwari kumeze nko uguhinda kw'imikogote ikwegwa n'amafarasi menshi yiruka ija mu ntambara.

© 2007 Bible Society of Burundi.

10Kandi zari zifise imirizo nk'iya sikorupiyo, n'imboyi, kandi mu mirizo yazo ni ho harimwo ubushobozi bwo kubabaza abantu amezi atanu.

11Zifise umwami wazo, ni we mumarayika w'i kuzimu, mu Giheburayo yitwa Abadoni, mu Kigiriki yitwa Apoluwoni.

12Ibara rya mbere riraheze, ehe ukundi kubona ivyago bibiri guhava kuza hanyuma.

13Umumarayika wa gatandatu aravuza, numva ijwi riva ku mahembe ane y'igicaniro c'izahabu kiri imbere y'Imana,

14ribarira umumarayika wa gatandatu afise inzumbeti riti: "Bohora abamarayika bane babohewe ku ruzi runini Efurate.”

15Abo bamarayika bane, bari biteguriye iyo saha, uwo musi, ukwo kwezi n'uwo mwaka, babohorerwa kwica ica gatatu c'abantu.

16Igitigiri c'ingabo z'abarwanira ku mafarasi cari ibihumbi amajana igihumbi kabiri. Igitigiri cabo naracumvise.

17Kandi nerekwa ntya amafarasi n'abari bayicayeko. Bari bambaye ivyuma bikingira ibikiriza, bisa n'ikibengebenge, agafyiri n'ibizuku. Imitwe y'ayo mafarasi yari nk'iyo intambwe, mu kanwa kayo havamwo umuriro, umwotsi n'ibizuku.

18Icagatatu c'abantu cicwa n'ivyo vyago, uko ari bitatu, umuriro, umwotsi n'ibizuku, bivuye mu kanwa kayo.

19Kuko ububasha bw'ayo mafarasi buri mu kanwa kayo no mu mirizo yayo kuko imirizo yayo imeze nk'inzoka, na yo iri n'imitwe, kandi ni yo aryanisha.

20Abantu barokotse, batishwe n'ivyo vyago, ntibihana ivyakozwe n'intoke zabo, ngo bareke gusenga abadayimoni, ibigirwamana vy'izahabu, ivyo ifeza, ivyo imiringa n'ivyo amabuye n'ivyo ibiti, bidashobora kubona canke kwumva canke kugenda.

21Kandi ntibihana ngo bareke ubwicanyi bwabo, canke uburozi canke ugushegura canke ubusuma.

## Intangamarara 10

1Mbona uwundi mumarayika w'inkomezi, amanuka ava mw'ijuru, yambaye igicu, no mu mutwe yari yambaye umunywamazi, mu maso hiwe hasa n'izuba, amaguru yiwe asa n'inkingi z'umuriro.

2Yari afise mu minwe agatabo kazinguruye, ashinga ikirenge c'i buryo ku kiyaga, ico mu bubamfu agishinga i musozi.

3Asemerera n'ijwi rirenga, nk'uko intambwe yivuga. Asemereye, imituragaro indwi ituragara amajwi yayo.

4Kandi imituragaro indwi imaze kuvuga nariko ngira nandike. Numva ijwi rivuye mw'ijuru rimbarira riti: "Matanisha ishashara utereko ikidodo ivyo imituragaro indwi ivuze, ntuvyandike.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

5Umumarayika nabonye ahagaze ku kiyaga n'i musozi, amanika ukuboko kw'i buryo,
agutumbereje mw'ijuru,

6arahira Iyibaho ibihe bitazoshira, yaremye ijuru n'ibirimwo, n'isi n'ibirimwo,
n'ikiyaga n'ibirimwo ati: "Ntibigitevye."

7Ariko mu misi y'ijwi ry'umumarayika w'indwi, aho azoba agira avuze inzumbeti, ni
ho ibanga ry'Imana rizoba riheraherejwe, nk'uko yabariye abasavyi bayo ubutumwa
bwiza, ni bo bavugishwa na yo.

8Rya jwi numvise rivuye mw'ijuru nongera kuryumva rimbarira riti: "Genda wakire
igitabo kizinguruye kiri mu kuboko kw'umumarayika, ahagaze ku kiyaga n'i musozi.

9Nja aho uwo mumarayika ari, ndamubwira kumpa ako gatabo." Arambarira ati: "Ehe
ukamiragure, karakururira mu nda, ariko mu kanwa karagusosera nk'ubuki."

10Nakira ako gatabo, ndagakura mu kuboko kw'umumarayika, ndakamiragura; mu
kanwa kansosera nk'ubuki; maze kukarya mu nda hacika umururazi.

11Barambarira bati: "Ukwiye kuzosubira kuvugishwa ivyo amoko menshi, amahanga
menshi, indimi nyinshi n'abami benshi.

## Intangamarara 11

1Bampa irenga rimeze nk'inkoni bati: "Va hasi ugere urusengero rw'Imana n'igicaniro
n'abarusengeramwo.

2Imbuga y'urusengero uyireke, ntuyigere, kuko yahawe abanyamahanga. Kandi
n'igisagara cera bazogisiribanga amezi mirongo ine n'abiri.

3Kandi abanshingira intahe babiri nzobavugisha, bazovugishwa imisi igihumbi n'
amajana abiri na mirongo itandatu bambaye amagunira."

4Abo ni bo biti bibiri vy'imyelayo n'ibiterekwako amatara bibiri, bihagaze imbere ya
nyene isi.

5Kandi iyo umuntu agomvye kubagirira nabi umuriro ubava mu kanwa, ugaturira
abansi babo, kandi umuntu ni yagomba kubagirira nabi uko ni ko akwiye kwicwa.

6Abo bafise ubushobozi bwo gukinga ijuru, ngo imvura ntikoroke mu misi yo
kuvugishwa kwabo, kandi bafise ubushobozi ku mazi bwo kuyahindura amaraso no
kubabarisha isi icago cose, uko bagomvye.

7Kandi ni baheza gushinga intahe, igikoko kizoduga kivuye i kuzimu, kizobarwanya,
kibaneshe, kibice.

8Imivyimba yabo izorambarara mw'ibarabara ryo mu gisagara kinini, ni co, mu buryo
bw'impwemu citwa Sodomu na Misiri, kandi ni ho Umwami wabo yabambwe.

9Kandi abo mu moko, mu miryango, mu ndimi n'amahanga bazoraba imivyimba yabo
imisi itatu n'igice, ntibazokunda ko iyo mivyimba ihambwa.

© 2007 Bible Society of Burundi.

10Abari mw'isi bazonezerwa, bazobitamba ku muvyimba, barungikiranire amashimwe, kuko abo bavugishwa n'Imana batoneka abari mw'isi.

11Iyo misi itatu n'igice ishize impwemu z'ubugingo zivuye ku Mana zibinjiramwo, baravyuka, barahagarara. Ubwoba bwinshi butera ababaraba.

12Bumva ijwi rirenga rivuye mw'ijuru ribabarira riti: "Ni muduge muze ino." Baduga mu gicu baja mw'ijuru abansi babo barorera.

13Uwo mwanya isi iratigita, icacumi ca ca gisagara kirasenyuka, ukwo gutigita kwica abantu ibihumbi indwi, abarokotse baterwa n'ubwoba, bahimbaza Imana Nyenijuru.

14Ibara rya kabiri riraheze; ehe irya gatatu rigira rize.

15Umumarayika w'indwi avuza inzumbeti; mw'ijuru hakurikira amajwi arenga ati: "Ubwami bw'isi buhindutse ubwo Umwami wacu n'ubwa Kristo wiwe, kandi azohora ahangamye ibihe bitazoshira."

16Ba bakuru mirongo ibiri na bane, bicara ku ntebe zabo imbere y'Imana, bikubita hasi bubamye, basenga Imana

17bati: "Turagushimye, Mwami Mana ushobora vyose, uriho kandi wamyeho, kuko wakiriye ububasha bwawe buhambaye, ukimikwa."

18Kandi amahanga arashavura, ishavu ryawe riraza, igihe co guciramwo imanza abapfuye kirashika, n'ico kugereramwo abasavyi bawe, ni bo bavugishwa nawe, no kugerera abera n'abubaha izina ryawe, aboroshe n'abahambaye, n'ico guhonerezamwo abahonya isi.

19Urusengero rw'Imana rwo mw'ijuru rurugururwa, mu rusengero rwayo habonekamwo isandugu y'isezerano ryayo, hakurikira imiravyo, amajwi, imituragaro, gutigita kw'isi n'urubura ruhambaye.

## Intangamarara 12

1Ikimenyetso gihambaye kiboneka mw'ijuru. Umugore yambaye izuba, ukwezi kwari musi y'ibirenge vyiwe, mu mutwe yambaye igitsibo c'inyenyeri icumi na zibiri;

2kandi yari akuriwe, atura akaborogo, kuko aramutswe, ababazwa n'ibise.

3Mw'ijuru haboneka ikindi kimenyetso, igisato c'amahero gisa n'ikibengebenge, gifise imitwe indwi n'amahembe icumi, no mu mitwe yaco cambaye imigara indwi.

4Umurizo waco ukwega ica gatatu c'inyenyeri zo kw'ijuru, uzishiburira kw'isi. Ico gisato gihagarara imbere y'uwo mugore agira avyare, kugira ngo ni yavyara kirotse umwana wiwe.

5Avyara umwana w'umuhungu, ni we azoragiza amahanga inkoni y'icuma. Umwana wiwe arasahurwa, ajanwa ku Mana no ku ntebe yayo.

6Umugore ahungira mu bugaragwa, aho afise ahantu yateguriwe n'Imana, kugira ngo bamugaburirireyo imisi igihumbi n'amajana abiri na mirongo itandatu.

© 2007 Bible Society of Burundi.

7Mw'ijuru havyuka intambara. Mikayeli n'abamarayika biwe barwanya ca gisato. Igisato kirwanana n'abamarayika baco,

8ariko ntibatsinda, kandi mw'ijuru ahabo ntihaba hakiboneka.

9Ca gisato c'amahero kirakororwa, ni co ya nzoka ya mbere, yitwa Mwansi, irindi ni Satani, ni co kizimiza abari kw'isi bose, gikororerwa kw'isi, abamarayika baco bakororanwa na co.

10Mw'ijuru numva ijwi rirenga riti: "Noneho agakiza karashitse, gashikanye n'ubushobozi n'ubwami bw'Imana yacu n'ububasha bwa Kristo wayo; kuko Umurezi w'umuvukanyi wacu yahora abarega ku murango no mw'ijoro imbere y'Imana yacu akororewe hasi.

11Na bo bamuneshesheje amaraso y' Umwagazi w'Intama n'ijambo ryo gushinga intahe kwabo, ntibakunda amagara yabo, ntibanka no gupfa.”

12Nuko noneho munezerwe mwa majuru, namwe abayabamwo. Ibara rizobonwa n'isi n'ikiyaga, kuko Umwansi yabamanukiye, ari n'inzigo nyinshi, azi ko afise igihe gito.

13Kandi ca gisato, kibonye yuko gikororewe kw'isi, gihiga wa mugore yavyaye umuhungu.

14Umugore ahabwa amababa abiri y'inkukuma nini, kugira ngo agurukire mu bugaragwa ahantu hiwe, aho agaburirirwa igihe n'ibihe n'igice c'igihe, arindwa ico kiyoka.

15Ico kiyoka gisendanisha amazi nk'uruzi avuye mu kanwa kaco inyuma y'uwo mugore kugira ngo kimutwaze uruzi.

16Isi itabara uwo mugore, yasamika akanwa kayo, imira uruzi ca gisato casendanishije.

17Ico gisato kigirira wa mugore inzigo, kirigira ngo kirwanye abo mu ruvyaro rwiwe basigaye, bitondera ivyagezwe n'Imana kandi bafise ibishingira Yesu intahe.

## Intangamarara 13

1Ahagarara ku musenyi wo ku kiyaga. Hanyuma mbona igikoko ciburuka kiva mu kiyaga, gifise amahembe icumi n'imitwe indwi. Ku mahembe yaco hariho imigara icumi, no ku mitwe yaco hariho amazina yo gutyoza.

2Ico gikoko nabonye casa n'ingwe, amajanja yaco yari ameze nk'ayo ikirara, akanwa kaco kari kameze nk'ako intambwe. Ca gisato kigiha ububasha bwaco, no kuja ku butware bwaco, n'ubutware buhambaye.

3Muri ya mitwe yaco mbonamwo umwe usa n'uwukomeretse ugira ucikane. Uruguma rwocishe rurakira. Isi yose ikurikira ico gikoko bagitangarira.

© 2007 Bible Society of Burundi.

4Batazira ico gisato bagisenga, kuko cahaye ico gikoko ububasha bwaco; batazira na kino gikoko bagisenga bati: "Ni nde ahwanye n'iki gikoko, kandi ni nde ashobora kukirwanya?"

5Gihabwa akanwa kavuga ibihambaye n'ivyo gutyoza Imana. Gihabwa n'ubushobozi bwo gushishikara amezi mirongo ine n'abiri.

6Giteranura akanwa kaco gityoza Imana, gityoza n'izina ryayo, n'ihema ryayo, n'ababa mw'ijuru.

7Gihabwa kurwanya abera no kubanesha, kandi gihabwa gutwara imiryango yose, amoko yose, indimi zose n'amahanga yose.

8Kandi ababa kw'isi bose bazogisenga, kandi kizosengwa n'uwuba kw'isi wese izina ritanditswe mu gitabo c'ubugingo c'Umwagazi w'Intama yatanzwe ko ishikanwa uhereye ku kuremwa kw'isi.

9Namba hari umuntu ari n'ugutwi ni yumve.

10Namba umuntu yagerewe gufatwa mpiri azofatwa mpiri; namba umuntu yicisha inkota akwiye kuzokwicishwa inkota. Aho ni ho ukwihangana kw'abera guserukira bo n'ukwizera kwabo.

11Kandi mbona ikindi gikoko gisokorotse mw'isi; gifise amahembe abiri nk'ayo umwagazi w'intama, kivuga nk'igisato.

12Kiganzisha ububasha bwose bwa ca gisato ca mbere mu maso yaryo, kigobera isi n'abayibako gusenga ca gikoko ca mbere, cakize uruguma rwocishe.

13Kandi gikora ibimenyetso bihambaye, kimanura umuriro uva mw'ijuru utibukira kw'isi mu maso y'abantu.

14Kizimirisha ababa kw'isi ibimenyetso cahawe gukorera mu maso ya ca gikoko, kibarira ababa kw'isi gukora igishusho ca ca gikoko cari n'uruguma rw'inkota, kigahava kikabaho.

15Gihabwa guha ico gishusho c'igikoko guhumeka, ngo ico gishushanyo c'igikoko kivuge, kandi cicishe abatazogisenga bose.

16Kigera ko bose, aboroshe, abahambaye, abatunzi, aboro, abidegemvya n'abakozi, bashirwako ikimenyetso ku kiganza c'i buryo canke mu ruhanga.

17Kandi ko hatagira umuntu yemererwa kugira ico agura canke ico ashora, atari uwufise ico kimenyetso, ni co zina rya ca gikoko canke igitigiri c'izina ryaryo.

18Aho ni ho ubwenge buserukira. Uwufise ubwenge n'aharure igitigiri c'ico gikoko. Ni igitigiri c'umuntu. Igitigiri caco ni amajana atandatu na mirongo itandatu na gatandatu.

## Intangamarara 14

© 2007 Bible Society of Burundi.

1Kandi mbona Umwagazi w'Intama, ahagaze ku musozi Siyoni, ahagararanye n'abantu ibihumbi ijana na mirongo ine na bine, bafise izina ryiwe n'izina rya Se yanditswe mu ruhanga rwabo.

2Numva ijwi rivuye mw'ijuru, nk'iryo amazi menshi asuma, kandi nk'iryoinkuba ituragara cane. Kandi iryo jwi numvise ryari rimeze nk'iryo abacuraranzi bacuraranga inanga zabo.

3Baririmbira indirimbo nshasha imbere ya ya ntebe y'ubwami, n'imbere ya vya binyabugingo bine na ba bakuru. Nta muntu yashoboye kwiga iyo ndirimbo atari bamwe ibihumbi ijana na mirongo ine na bine, bacunguwe ngo bakurwe mw'isi.

4Abo ni bo batandujwe n'icitwa umugore, kuko Babaye nk'inkumi. Abo ni bo bakurikira wa Mwagazi aho aja hose. Abo bacunguwe mu bantu, kugira ngo babe ku vyeze ubwa mbere ku Mana no kuri wa Mwagazi.

5Kandi mu kanwa kabo ntihabonetsemwo ikinyoma; nta gasembwa bagira.

6Kandi mbona uwundi mumarayika aguruka yatiriye ijuru, afise ubutumwa bwiza butazoshira bwo kubarira ababa kw'isi n'amahanga yose n'imiryango yose n'indimi zose n'amoko yose.

7Avuga n'ijwi rirenga ati: "Mwubahe Imana, muyihimbaze, kuko igihe c'imanza zayo gishitse, musenge iyaremye ijuru, isi, ikiyaga n'amasoko y'amazi.”

8Umumarayika wundi wa kabiri akurikizako ati: "Kirasenyaguritse, kirasenyaguritse, Babuloni, ca gisagara gihambaye, cateretse amahanga yose umuvinyu ni yo shavu y'ubushakanyi bwaco.

9Umumarayika wundi wa gatatu akurikirirako, avuga n'ijwi rirenga ati: "Ni hagira umuntu asenga ca gikoko n'igishushanyo caco, akemera gushirwako ikimenyetso mu ruhanga canke ku kiganza,

10uwo na we azonywa ku muvinyu, ni yo burake bw'Imana, iteguwe idafunguye mu gakarabo k'ishavu ryayo. Kandi azobabarizwa n'umuriro n'ibizuku imbere y'abamarayika bera n'imbere ya wa Mwagazi.

11Umwotsi wo kubabazwa kwabo upfunduka ibihe bitazoshira, kandi ntibaruhuka ku murango no mw'ijoro, abasenze ca gikoko n'igishushanyo caco, umuntu wese yemeye gushirwako ikimenyetso c'izina ryaryo.

12Aho ni ho ukwihangana kw'abera guserukira, bitondera ivyagezwe n'Imana n'ukwizera Yesu.

13Numva ijwi rivuye mw'ijuru rimbwira riti: "Andika uti: 'Kuva ubu Harahiriwe abapfa bapfira mu Mwami.' " Kandi Mpwemu aravuga ati: "Ego me, ngo baruhuke ubutame bwabo, kuko ibikorwa vyabo bijana na bo bibakurikiye.”

14Kandi mbona igicu cera; no kuri kino gicu ukivyagiyeko, asa n'Umwana w'umuntu, yambaye igitsibo c'izahabu mu mutwe, kandi afise umuhoro ukarishe mu kuboko.

© 2007 Bible Society of Burundi.

15Umumarayika wundi ava mu rusengero, asemerera n'ijwi rirenga, abwira uwuvyagiye kuri ico gicu ati: "Ni urungike umuhoro wawe, wimbure, kuko iyimbura rishitse, kandi ivyimburwa vyo mw'isi vyumye."

16Uwuvyagiye ku gicu arekurira umuhoro wiwe mw'isi, isi irimburwa.

17Umumarayika wundi ava muri rwa rusengero rwo mw'ijuru, na we nyene afise umuhoro ukarishe.

18Umumarayika wundi ava ku gicaniro, ni we aganza umuriro, asemerera n'ijwi rirenga, abarira uwufise umuhoro ukarishe ati: "Rungika umuhoro wawe ukarishe, uce inzabibu zo ku muzabibu w'isi, kuko imbuto zawo zirungurije."

19Umumarayika arekurira umuhoro wiwe mw'isi, aca inzabibu z'umuzabibu w'isi, aziterera mu bwato bunini bw'ukuraka kw'Imana.

20Ubwo bwato buganishirizwamwo ibirenge inyuma ya ca gisagara, amaraso ava mu bwato, ashitsa stadiyo igihumbi n'amajana atandatu, agera ku vyuma bifata mu kanwa k' amafarasi.

## Intangamarara 15

1Mbona ikindi kimenyetso mw'ijuru gihambaye, gitangaza, abamarayika indwi bafise ivyago indwi, ni vyo vy'iherezo, kuko muri ivyo ari ho ishavu ry'Imana buheraherezwa.

2Mbona igisa n'ikiyaga c'ibirahuri kivanze n'umuriro; mbona abavuye ku rugamba banesheje ca gikoko n'igishushanyo caco n'igitigiri c'izina ryaryo, bahagaze kuri ico kiyaga c'ibirahuri, bafise inanga z'Imana.

3Baririmba indirimbo ya Mose umusavyi w' Imana, n'indirimbo ya wa Mwagazi bati: "Ibikorwa vyawe birahambaye kandi biratangaza, Mwami Mana ushobora vyose; inzira zawe n'izo ukugororoka ni ukuri, Mukama w'amahanga."

4Ni nde atazogutinya ga Mwami, canke atazohimbaza izina ryawe? Kuko ari wewe wenyene wera, amahanga yose azoza akwikubite imbere, agusenge, kuko imanza zawe zigororotse ziseruwe.

5Hanyuma y'ivyo mbona huguruka urusengero rw 'ihema ry'ibisate vy' amabwirizwa icumi rwo mw'ijuru,

6hasohoka ba bamarayika indwi bava muri urwo rusengero bafise vya vyago indwi, bambaye impuzu zera zitanduye, zikayangana, kandi bambaye imikanda y'izahabu mu gikiriza.

7Kimwe muri vya binyabugingo bine giha bano bamarayika indwi inzavya indwi z'izahabu, zuzuye ishavu ry' Imana ibaho ibihe bitazoshira.

8Rwa rusengero rwuzura umwotsi uva mu bwiza bw'Imana no mu bushobozi bwayo, kandi nta washoboye kwinjira muri urwo rusengero, gushitsa aho vya vyago indwi vy'abo bamarayika indwi vyaheraherejwe.

© 2007 Bible Society of Burundi.

## Intangamarara 16

1Numva ijwi rirenga rivuye muri rwa rusengero ribarira ba bamarayika indwi riti: "Ni
mugende, musuke kw'isi izo nzavya indwi z'ishavu ry'Imana.”

2Uwa mbere aragenda, asuka urwavya rwiwe kw'isi, abantu bafise ikimenyetso ca ca
gikoko, bagasenga igishushanyo caco, bafatwa n'ibisebe bikomeye bibi.

3Uwa kabiri asuka urwavya rwiwe mu kiyaga, gicika amaraso nk'ayo uwupfuye.
Ikintu cose co mu kiyaga kiri n'ubugingo kirapfa.

4Uwa gatatu asuka urwavya rwiwe mu nzuzi no mu masoko, bicika amaraso.

5Numva umumarayika w'amazi avuga ati: "Uragororotse, uriho kandi wamyeho,
Uwera, kuko uciye urwo rubanza.”

6Bavishije amaraso y'abera n'ayo abavugishijwe nawe, kandi amaraso nyene ni yo
ubahaye ngo banywe. Birababereye.

7Numva igicaniro kivuga kiti: "Ego me Mwami Mana ushobora vyose, imanza yawe
n'ayo ukuri n'ukugororoka.”

8Uwa kane asuka urwavya rwiwe mu zuba. Rihabwa kubaburisha abantu umuriro.

9Abantu bababurwa n'indugumba nyinshi, batyoza izina ry'Imana igaba ivyo vyago,
ntibihana ngo bayihimbaze.

10Uwa gatanu asuka urwavya rwiwe ku ntebe y'ubwami ya ca gikoko. Ubwami bwaco
bucura umwiza, uburibwe butuma bahekenya indimi zabo,

11kandi uburibwe bwabo n'ibisebe vyabo bituma batyoza Imana Nyenijuru, kandi
ntibihana ngo bareke ibikorwa vyabo.

12Uwa gatandatu asuka urwavya rwiwe mu ruzi runini Efurate. Amazi yarwo
arakama, kugira ngo inzira y'abami bava i buseruko itegurwe.

13Kandi mbona mu kanwa ka ca gisato no mu kanwa ka ca gikoko no mu kanwa ka
wa muvugishwa w'ibinyoma, havamwo impwemu zitatu zihumanya, zisa n'ibikere.

14Kuko izo ari impwemu z'abadayimoni, zikora ibimenyetso, zija ku bami bo mw'isi
yose, ngo zibakoranirize ku ntambara yo ku musi uhambaye w'Imana Ishobora vyose.

15(Ehe ndaza nk'igisuma. Harahiriwe uwuba maso, akazigama impuzu ziwe, ngo
ntagende amenya, bakabona isoni z'ubwambure bwiwe. )

16Zibakoraniriza ahantu hitwa Haru-Magedoni mu Giheburayo.

17Uwo indwi asuka urwavya rwiwe mu kirere. Ijwi rirenga riva mu rusengero kuri ya
ntebe, rivuga riti: "Karabaye.”

18Habaho imiravyo, amajwi, imituragaro, habaho no gutigita kw'isi guhambaye; nta
gutigita kunganya n'ukwo ubuhambazi no gukomera kwigeze kubaho, uhereye aho
abantu bakabereye kw'isi.

© 2007 Bible Society of Burundi.

19Ca gisagara gihambaye kigabanywamwo gutatu, ibisagara vy'abanyamahanga birasenyuka. I Babuloni hahambaye hibukwa imbere y'Imana, ngo hahabwe agakarabo k'umuvinyu w'ishavu ryayo ry'inkazi.

20Ibizinga vyo mu kiyaga vyose birahunga kandi imisozi ntiyasubira kuboneka.

21Urubura ruhambaye, ibuye rimwe ryarwo riremereye nk'italanto, rukoragurikira ku bantu ruvuye mw'ijuru. Ico cago c'urubura gituma abantu batyoza Imana, kuko icago carwo gikomeye cane.

## Intangamarara 17

1Haza umwe wo muri ba bamarayika indwi bari bafise za nzavya indwi, avugana nanje, arambwira ati: "Ngwino nkwereke igihano kizohabwa Maraya w'agahebuza, yicaye ko iteraniro ry'amazi menshi.”

2Uwasambana n'abami bo kw'isi, ababa kw'isi bakaborerwa umuvinyu, ni zo busambanyi bwiwe.

3Anjana mu bugaragwa ndi muri Mpwemu. Mbona umugore yicaye ku gikoko gisa n'agahama, cuzuye amazina yo gutyozanya, gifise imitwe indwi n'amahembe icumi.

4Uwo mugore yambaye impuzu itukura y'agaciro n'iyo agahama, yari yisakaye izahabu n'utubuye tw'igiciro kinini n'imaragarita, afise igikombe c'izahabu mu minwe cuzuye ibihumanya n'imyanda y'ubusambanyi bwiwe.

5Mu ruhanga afise izina ry'akabanga, ryanditswe ngo BABULONI HAHAMBAYE, NYINA WA BA MARAYA, KANDI NYINA W' IBIHUMANYA VYO mw'isi.

6Kandi mbona uwo mugore aborewe amaraso y'abera n'amaraso y'abashingiye intahe ivya Yesu. Ndamubonye birantangaza ndumirwa rwose.

7Umumarayika arambaza ati: "Ni igiki kigutangaje?" Ndakubwira akabanga k'uriya mugore n'ako igikoko agenderako gifise imitwe indwi n'amahembe icumi.

8Igikoko ubonye cariho kandi ntikikiriho, kandi kigira kiduge kive i kuzimu, kije kuranduka. Kandi ababa kw'isi amazina yabo atanditswe mu gitabo c'ubugingo, uhereye ku kuremwa kw'isi, bazotangara babonye ico gikoko yuko cariho kandi kitakiriho, kandi kizoboneka.

9Aha ni ho umutima w'ubwenge userukira. Iyo mitwe indwi ni yo misozi indwi uwo mugore yicayeko.

10Kandi ni yo bami indwi. Batanu bakuwe ku butegetsi, umwe ariho, uwundi we ntaraza, kandi ni yaza azoba ari uwo kumara igihe gito.

11Kandi ca gikoko, cariho kandi kitakiriho, ico ubwaco ni uwugira umunani, ariko kandi n'umwe muri ba bandi indwi, kandi azoja kuranduka.

12Kandi amahembe icumi wabonye ni yo bami icumi batarima, ariko bahabwa kuganziriza hamwe na ca gikoko nk'abami nyene, kumara isaha imwe.

© 2007 Bible Society of Burundi.

13Abo bahuza inama, baha ca gikoko ububasha bwabo n'ubutware bwabo.

14Abo bazorwanya Umwagazi w'Intama, uwo Mwagazi azobanesha, kuko ari we aganza abaganza n'Umwami w'abami, kandi abari kumwe na we, bahamagawe, batoranijwe, bayobotse, na bo bazobanesha.

15Arambwira ati: "Ya mazi wabonye, maraya yicarako, ni yo moko, amakungu y'abantu, amahanga n'indimi.”

16Ya mahembe icumi wabonye na ca gikoko bizokwanka uwo maraya, bizomuzingazinga, bimukobe, birye inyama ziwe, bimutongoze umuriro.

17Kuko Imana yashize mu mitima yabo gukora ivyo yagabiye, no guhuza inama, no gushira ca gikoko ku butware bwabo, kugeza aho amajambo y'Imana azoshikira.

18Umugore wabonye ni we ca gisagara gihambaye, kiganza abami bo kw'isi.

## Intangamarara 18

1Hanyuma y'ivyo mbona uwundi mumarayika, amanuka avuye mw'ijuru, afise ubutware buhambaye, isi ibonesherezwa n'ubwiza bwiwe.

2Asemerera n'ijwi rirenga ati: "Kiraherengeteye, kiraherengeteye, Babuloni ca gisagara gihambaye, gicitse ikibanza c'abadayimoni, aharindirwa impwemu zihumanya zose, aharindirwa ibisiga bihumanya vyankwa vyose.”

3Kuko amahanga yose yanyoye umuvinyu, ni zo burake bw'ubusambanyi bwiwe, kandi abami bo kw'isi basambana na we, abadandaza bo kw'isi batungishwa n'ubwinshi bw'ibihinda vyiwe.

4Numva irindi jwi rivuye mw'ijuru, rivuga riti: "Bantu banje, ni muve i we, kugira ngo ntimufatanye n'ivyaha vyiwe, ntimuhabwe ku vyago vyiwe.”

5Kuko ivyaha vyiwe vyarundanijwe bigashika kw'ijuru, kandi Imana yibutse ukugabitanya kwiwe.

6Mumugirire ibihwanye n'ivyo yagiriye abandi, mumugerere kabiri ibikwiranye n'ivyo yakoze. Mu gakarabo yavangiyemwo, mumuvangiremwo kabiri.

7Nk'uko yihimbaza, akigirira ibihinda, abe ari ko mumuha kubabazwa agashinyaguro no kuboroga. Kuko yibwira mu mutima, ngo arayagiye ari umwamikazi, si umupfakazi, ntazobona amaborogo n'amagorwa namba.

8Ni co gituma ivyago vyiwe vyose bizoza ku musi umwe, hazoza urupfu, amaborogo n'amapfa, kandi azotongozwa umuriro; kuko Umwami Imana amuciriyeko iteka ari uwo ubushobozi.

9Kandi abami bo kw'isi, abasambana na we, bagasangira na we ibihinda vyiwe, bazomuririra, bamuvugirize induru, aho bazobonera umwotsi wo kuyigizwa kwiwe.

© 2007 Bible Society of Burundi.

10Bahagaritswe kure no gutinya ugushinyagurirwa kwiwe bati: "Ni ibara, ni ibara, ewe wa gisagara gihambaye, Babuloni, wa gisagara c'inkomezi, kuko mw'isaha imwe urubanza uciriwe rigushikiriye!

11N'abadandaza bo kw'isi barakiririra, barakiborogera, kuko ata wukibagurira ibidandazwa vyabo bizanwa mu bwato;

12ibidandazwa vy'izahabu, ifeza, utubuye tw'igiciro kinini, ubuyeye, impuzu zera nziza, izitukura zizimvye, ihariri, izo agahama, imbaho zose zimota neza, ibikoresho vyose vyakozwe mu mahembe y'inzovu, ibikoresho vyose vy'ivyabajwe mu biti vy'igiciro kinini, ivyacuzwe mu miringa no mu butare, ivyabajwe mw'ibuye ryitwa marimari,

13ibisosa vyitwa mudarasini, imbazi, imibavu, amavuta amota neza, isenga, umuvinyu, amavuta ya elayo, ifu isetse neza, ingano, inka, intama, amafarasi, imikogote, imibiri y'abantu n'ubugingo bwabo.

14(Kandi iyera ry'ukwifuza kw'umutima wawe rirakuvuyeko; n'ibintu vyose biryoshe n'ibirabika neza biguhonyeko, ntibazokwongera namba kubibona. )

15Abashora ivyo, batungishijwe n'ico gisagara, bazohagarikwa kure no gutinya ugushinyagurirwa kwaco, barira ba boroga

16bati: "Ni ibara, ni ibara, ca gisagara gihambaye, cambaye impuzu zera nziza, izo inyambarabami n'izo agahama, kandi cisakaye izahabu n'utubuye tw'igiciro kinini n'imaragarita,

17kuko ubutunzi bungaho buherengeteye mw'isaha imwe! Kandi nyene ubwato wese, n'umuntu wese abujabukirizwamwo ahantu hose, abasoza, abatunzwe n'ikiyaga, bari bahagaze kure,

18kandi bakiraba umwotsi wo kuyigizwa kwaco baratakа bati: "Ni ikihe cari gihwanye na kiriya gisagara gihambaye?”

19Biyorera imikungugu ku mitwe, bataka barira baboroga bati: "Ni ibara, ni ibara, ca gisagara gihambaye, catungishije ubutunzi bwaco abafise amato yabo mu kiyaga bose, kuko caherengeteye mw'isaha imwe !”

20Ni biguhimbare, wa juru, namwe abera n'intumwa n'abavugishwa n'Imana, kuko Imana igiciriyeko iteka, igihora mwebwe.

21Umumarayika w'inkomezi araha ikibuye kimeze nk'igisyo kinini, agita mu kiyaga ati: "Uko ni ko Babuloni igisagara gihambaye kizotererwa kigenda imivuguvugu, kandi ntikizosubira ukundi kuboneka.”

22Nta jwi ry'abacuraranzi, iryo abaririmvyi, irya abavuza imyironge canke iryo abavuza inzumbeti rizosubira kukwumvikanamwo. Kandi nta muhinga w'umunyabuhinga bwose agisubira kuboneka muri wewe ukundi, kandi ukuvuga kw'urusyo ntikugisubira kwumvikana muri wewe ukundi.

© 2007 Bible Society of Burundi.

[23]Kandi ukumurika kw'itara ntikugisubira kukubonekamwo ukundi, kandi ijwi ry'umukwe n'iryo umugeni ntirigisubira kukwumvikanamwo. Abadandaza bawe bari abahambaye bo kw'isi, kuko amahanga yose yahendahenzwe n'uburozi bwawe.

[24]Kandi muri ico gisagara amaraso y' abavugishwa n'Imana, ayo abera n'ayo abishwe bo kw'isi bose ni ho yabonetse.

## Intangamarara 19

[1]Hanyuma y'ivyo numva mw'ijuru ikimeze nk'ijwi rirenga ry'ishengero ryinshi riti: "Haleluya; agakiza, ubwiza n'ububasha ni ivyo Imana yacu,

[2]kuko imanza zayo ari izo ukuri n'ubutungane." Yaciriye urubanza umwe maraya w'agahebuza, yononesha abari mw'isi ubusambanyi bwiwe, kandi imuhoye amaraso y' abakozi bayo.

[3]Rivuga ubugira kabiri riti: "Haleluya." Kandi umwotsi wiwe upfunduka ibihe bitazoshira.

[4]Ba bakuru mirongo ibiri na bane na vya binyabugingo bine vyikubita hasi, bisenga Imana ivyagira kuri ya ntebe biti: "Amina; Haleluya."

[5]Ijwi riva kuri iyo ntebe rivuga riti: "Ni mushime Imana yacu, yemwe mwese abakozi bayo, abayubaha, ba bakene bo hasi n'abanyacubahiro."

[6]Numva ikimeze nk'ijwi ry'ishengero rinini, ikimeze nk'ugusuma kw'amazi menshi n'ikimeze nk'ijwi ry'imituragaro ihambaye, kivuga kati: "Haleluya, kuko Umwami Imana yacu Iyishoboravyose ihangamye."

[7]Tunezerwe, duhimbarwe, tuyihe icubahiro, kuko ubukwe bwa wa Mwagazi w' Intama bushitse, umugeni wiwe ariteguye.

[8]Kandi yahawe kwambara impuzu zera nziza, zikayangana, zitanduye; izo mpuzu zera nziza ni zo bikorwa vyo kugororoka vy'abera.

[9]Umumarayika arambarira ati: "Andika uti: 'Abatorewe gutaha ubukwe bwa wa Mwagazi barahiriwe.' " Kandi arambarira ati: "Ayo ni amajambo y'ukuri y'Imana."

[10]Nikubitishwa hasi imbere y'ibirenge vyiwe no kumusenga. Arambarira ati: "Oya sigaho; ndi umushumba mugenzawe, co kimwe n'abavukanyi bawe bafise ivyo gushingira intahe Yesu. Imana ube ari yo usenga. Kuko abashingira intahe Yesu baba bavugishwa na Mpwemu.

[11]Mbona ijuru ryuguruye, kandi mbona ifarasi y'umwero, uwuyivyagiyeko yitwa Mwizigirwa, irindi ni Munyakuri. Aca imanza akarwana intambara mu bugororotsi.

[12]Amaso yiwe n'imbeya z'umuriro, no mu mutwe yambaye imigara myinshi, kandi afise izina ryanditswe, nta wurizi atari we wenyene.

[13]Yambaye impuzu zajobetswe mu maraso, kandi yitwa Jambo w'Imana.

© 2007 Bible Society of Burundi.

14Ingabo zo mw'ijuru ziramukurikira, zicaye ku mafarasi y'ibitare, zambaye impuzu nziza zera derere, zitanduye.

15Mu kanwa kiwe havamwo inkota ikarishe, kugira ngo ayikubite amahanga. Azoyaragiza inkoni y'icuma. Kandi aganishiriza ibirenge mu bwato umuvinyu w'ishavu ry'inkazi bw'Imana Ishobora vyose.

16Kandi ku mpuzu ziwe no ku kibero, afise izina ryanditsweko, ngo UMWAMI W'ABAMI, UWUGANZA ABAGANZA.

17Mbona umumarayika ahagaze ku zuba; asemerera n'ijwi rirenga, abarira ibisiga vyose biguruka vyarara kw'ijuru ati: "Ni muze mukoranire amazimano menshi y'Imana.

18Ingo murye inyama z' abami, izo abakuru b'intwazangabo z'abasoda, izo abahizi, izo amafarasi, izo abayicarako n'izo abantu bose, abidegemvya n'abagurano, aboroshe n'abahambaye.

19Mbona ca gikoko n'abami bo kw'isi n'ingabo zabo bakoraniye kurwanya uvyagiye kuri ya farasi n'ingabo ziwe.

20Ico gikoko bo na wa muvugishwa w'ibinyoma, yakorera vya bimenyetso mu maso yaco, akabazimirisha abemeye gushirwako ikimenyetso ca ca gikoko n'abasenga igishushanyo caco bifatwa mpiri. Vyompi bitererwa bibona mu kiyaga caka umuriro n'ibizuku.

21Abasigaye bicishwa inkota y'uwuvyagiye kuri ya farasi, imwe ivuye mu kanwa kiwe. Ibisiga vyose bigubwa mpishi n'inyama zavyo.

## Intangamarara 20

1Mbona umumarayika amanuka avuye mw'ijuru, afise urupfunguruzo rw'i kuzimu, afise n'ikinyororo mu minwe.

2Afata ca gisato, ni co ya nzoka ya mbere, ni yo mugarariji irindi ni Satani, akiboha ngo kimare imyaka igihumbi,

3agikororera i kuzimu, arahadadira, ashirako ikimenyetso kikirumanya, kugira ngo nticongere kuzimiza amahanga, gushitsa aho iyo myaka igihumbi izoshirira; ni yashira gikwiye kubohorwa ngo kimare igihe gito.

4Mbona intebe z'ubwami, mbona abicara kuri zo, bahabwa ubucamanza. Kandi mbona ubugingo bw' abaciwe amazosi, babahora gushingira intahe Yesu, n'ijambo ry'Imana, ni bo batasenze ca gikoko canke igishushanyo caco, kandi ntibemeye gushirwa ikimenyetso caco mu ruhanga canke ku kiganza. Baba bazima, bafatanya na Kristo kuganza imyaka igihumbi.

5Abapfuye bandi ntibaba bazima iyo myaka igihumbi itarashira. Ukwo ni kwo kuzuka kwa mbere.

© 2007 Bible Society of Burundi.

6Uwuri mu mugabane wo kuzuka kwa mbere arahiriwe kandi ni uwera. Urupfu rwa kabiri ntirugira ububasha ku bameze batyo, ariko bazoba abaherezi b'Imana na Kristo, kandi bazofatanya na we kuganza, iyo myaka igihumbi.

7Kandi iyo myaka igihumbi ni yashira, Satani azorekurwa ngo ave mw'ibohero,

8azosokoroka aje kuzimiza amahanga yo mu mpande zine z'isi, Gogi na Magogi, kugira ngo ayakoranirize hamwe mu ntambara, igitigiri cabo ni nk'umusenyi wo ku kiyaga.

9Baraduga bakwira isi yose, bakikiza aho ingabo z'abera zishagaje, na ca gisagara gikundwa. Umuriro uratibuka uvuye mw'ijuru, urabarigata.

10Kandi Umwansi yabazimiza atererwa muri ca kiyaga caka umuriro n'ibizuku, kirimwo na ca gikoko na wa muvugishwa w'ibinyoma, bazobabazwa ku murango no mw'ijoro ibihe bitazoshira.

11Mbona intebe niniya yera, mbona n'Iyivyagiyeko, isi n'ijuru bihunga mu maso hayo, aho vyahora ntihaba hakiboneka.

12Mbona abapfuye, abahambaye n'aboroshe, bahagaze imbere y'iyo ntebe; ibitabo birazingururwa. Kandi ikindi gitabo kirazingururwa, ni co gitabo c'ubugingo. Abapfuye bacirwa imanza z'ivyanditswe muri iyo misezero, zikwiranye n'ivyo bakoze.

13Ikiyaga kigarukana abagipfiriyemwo, urupfu n'i kuzimu bigarukana abagipfiriyemwo, bacirwa imanza zikwiranye n'ivyo umuntu wese yakoze.

14Rupfu na Kuzimu batererwa muri ca kiyaga caka umuriro. Ico kiyaga caka umuriro ni co rupfu rwa kabiri.

15Kandi umuntu wese atabonetseko yanditswe muri ca gitabo c'ubugingo atererwa muri ico kiyaga caka umuriro.

## Intangamarara 21

1Mbona ijuru rishasha n'isi nshasha; kuko ijuru rya mbere n'isi ya mbere vyari vyagiye, n'ikiyaga nticari kikiriho.

2Mbona umurwa wera, Yerusalemu mushasha, wururuka uva mw'ijuru ku Mana, witeye nk'uko umugeni asharizwa umugabo wiwe.

3Numva ijwi rirenga, rivuye kuri ya ntebe riti: "Ehe ihema ry'Imana riri kumwe n'abantu, kandi izogerera muri bo, na bo bazoba abantu bayo, kandi Imana ubwayo izobana na bo, izoba Imana yabo.”

4Izohanagura amosozi yose ku maso yabo, kandi urupfu ntiruzoba rukiriho, kandi amaborogo no gutaka n'uburibwe ntibizoba bikiriho; kuko ivya mbere bishize.

5Iyivyagira kuri ya ntebe iravuga iti: "Raba vyose ndabihindura bishasha." Kandi iti: "Andika, kuko ayo majambo ari ayo kwizerwa n'ayo ukuri.”

© 2007 Bible Society of Burundi.

6Kandi irambarira iti: "Karabaye." Ndi Alufa na Omega, itanguriro n'iherezo. Uwufise
inyota nzomuha kunywa ko isoko y'amazi y'ubugingo ku buntu.

7Uwunesha azoragwa ivyo, nanje nzoba Imana yiwe, na we azoba umwana wanje.

8Ariko ibijora, abatizera, abakora ibizira, abicanyi, abashurashuzi, abarozi, abasenga
ibigirwamana n'abanyabinyoma bose, umugabane wabo uzoba mu kiyaga caka
umuriro n'ibizuku, ni co rupfu rwa kabiri.

9Haza umwe wo muri ba bamarayika indwi, bari bafise za nzavya indwi zuzuye
ivyago indwi vy'iherezo, avugana nanje arambwira ati: "Ngwino nkwereke umugeni,
umugore wa wa Mwagazi."

10Anjana ku musozi munini muremure ndi muri Mpwemu, anyereka umurwa wera
Yerusalemu, wururuka uva mw'ijuru ku Mana,

11ufise ubwiza bw'Imana. Ugukayangana kwawo gusa n'ukw'ibuye ry'akabuye
k'igiciro ry'igiciro kinini cane, nk'akabuye k'igiciro kitwa yasipi, kabonerana
nk'icirore,

12ukikujwe n'uruhome runini rurerure rufise amarembo icumi na bibiri, no mu
marembo hariho abamarayika icumi na babiri, kandi hari amazina yanditsweko, ni yo
y'imiryango icumi n'ibiri y'Abisirayeli.

13Ahahera mu buseruko hari amarembo bitatu; ahahera buraruko hari amarembo
bitatu; ahahera mu bumanuko hari amarembo bitatu; ahahera mu burengero hari
amarembo bitatu.

14Urugo ruziguje uwo murwa rufise amatanguriro icumi n'abiri, yanditsweko amazina
icumi n'abiri y'intumwa icumi na zibiri za wa Mwagazi.

15Uwavugana nanje yarafise irenga ry'izahabu ry'ikigeresho, kugira ngo agere uwo
murwa n'amarembo vyawo n'urugo rwawo.

16Uwo murwa ungana impande zose, uburebure bungana n'ubwaguke. Apimisha uwo
murwa rya renga, apimisha stadiyo ibihumbi icumi na bibiri; uburebure bw'amakika
n'ubwaguke n'uburebure bw'amaja ruguru birangana.

17Apima urugo rwawo, rushikana amatambwe ijana na mirongo ine n'ane, y'ukuboko
uciriye mu nkokora, nk'uko itambwe ritambishwa ukuboko kw'umuntu ringana, ni ko
iryoumumarayika ringana.

18Urugo rwawo rwubakishijwe yasipi, umurwa wari izahabu ityoroye imeze
nk'ibirahuri bishize igihuhwa nyene.

19Imishinge y'urugo rwa wa murwa yari asharijwe n'amabuye y'amoko yose
y'utubuyenge tw'igiciro kinini. Ibuye ry'urufatiro rya mbere ryari yasipi, irya kabiri
ryari safiro, irya gatatu ryari kalukedoni, irya kane ryari simaragido,

© 2007 Bible Society of Burundi.

20irya gatanu ryari sarudonikisi, irya gatandatu ryari sarudiyo, iryoindwi ryari kirusolito, iryoumunani ryari berulo, iryoicenda ryari topazi, iryoicumi ryari kirusopuraso, iry'icumi na rimwe ryari huwakinto, iry'icumi na kabiri ryari ametusito.

21Kandi amarembo, uko ari icumi na bibiri, vyari ubuyeye icumi na zibiri. Ikirimba kimwe cubakishijwe imaragarita imwe, bityobityo. Irango rya wa murwa ryari izahabu nziza, isa n'ibirahuri bibonerana.

22Kandi sinabonye urusengero kuri wo, kuko Umwami Imana ishobora vyose na wa Mwagazi ari bo rusengero rwawo.

23Kandi wa murwa nturinda kwakirwa n'izuba canke n'ukwezi, kuko ubwiza bw'Imana ari bwo buwakira, kandi wa Mwagazi ari we tara ryawo.

24Kandi amahanga azogendera mu muco wawo, abami bo kw'isi bazozanayo ubwiza bwabo.

25Ibirimba vyawo ntibijishwa na rimwe, kuko ata joro ribayo.

26Kandi bazozanayo ubwiza n'icubahiro vy'amahanga.

27Kandi kuri wo nta ho hazogera ikintu gihumanya, canke uwukora ibizira akabesha, atari abanditswe mu gitabo c'ubugingo ca wa Mwagazi w'Intama.

## Intangamarara 22

1Anyereka uruzi rw' amazi y'ubugingo, rubonerana nk'icirore, ruva ku ntebe y'Imana na wa Mwagazi.

2Hagati y'irango rya wa murwa, hakurya no hakuno y'urwo ruzi hariho igiti c'ubugingo, cera icumi na kabiri mu mwaka, kikera rimwerimwe uko ukwezi gutashe. Ibibabi vyaryo vyari ivyo kuvura amahanga.

3Nta muvumo uzoba ukiriho. Intebe y'Imana na wa Mwagazi izoba muri wa murwa, abakozi bayo bazokwama bashashe,

4bazoraba mu maso hayo, izina ryayo rizokwandikwa mu ruhanga rwabo.

5Nta joro rizoba rikiriho, kandi ntibazorinda kubonesherezwa n'itara canke kwakirwa n'izuba, kuko Umwami Imana ari yo izobakira, kandi bazoba abami ibihe bitazoshira.

6Arambarira ati: "Ayo majambo ni ayo kwizerwa ni ayo ukuri, kandi Umwami, ni yo Mana itegeka impwemu z'abavugishwa na yo, yatumye umumarayika wiwe kwereka abakozi biwe ibigira bibeho vuba.

7Kandi ehe ndaza vuba. Harahiriwe uwitondera amajambo yavugishijwe yo muri iki gitabo.

8Ni jewe Yohana numvise ivyo, ndavyibonera. Maze kuvyumva no kubibona, nikubita hasi imbere y'ibirenge vy'umumarayika anyeretse ivyo, ngira ndamusenge.

© 2007 Bible Society of Burundi.

9Arambarira ati: "Oya sigaho; ndi umushumba mugenzawe, co kimwe n'abavukanyi bawe, abavugishwa n'Imana, n'uwo abitondera amajambo y'iki gitabo. Imana ba ari yo usenga.

10Kandi arambarira ati: "Ntumatanishe ishashara n'ikimenyetso amajambo avugishijwe n'Imana yo muri iki gitabo; kuko igihe kiri hafi.”

11Uwugabitanya n'ashishikare agabitanye; uwanduye mu mutima n'ashishikare yandure; uwugororotse n'ashishikare agororoke; uwera ni ashishikare yezwe.

12Ehe ndaza vuba, nzanye ingero, kugira ngo ngerere umuntu wese ibikwiranye n'ivyo yakoze.

13Ndi Alufa na Omega, uwa mbere n'uwa nyuma, itanguriro n'iherezo.

14Harahiriwe abamesura imvune zabo, kugira ngo babone kwegera ca giti c'ubugingo, kandi bace mu birimba bashike kuri wa murwa.

15Inyuma hazoba imbwa, abarozi, abashurashuzi, abicanyi, abasenga ibigirwamana n'umuntu wese akunda kubesha akabikora.

16Jewe Yesu ntumye umumarayika wanje gushingira intahe mwebwe ivyo, kubwo amashengero. Ni jewe munago wo ku gishitsi ca Dawidi, ndi umwuzukuruza wiwe, kandi ndi ikinyenyeri gica ibibatsi co mu gaturuturu.

17Kandi Mpwemu bo na wa mugeni barahamagara bati: "Ngwino." Kandi uwumva ni ahamagare ati: "Ngwino." Kandi uwufise inyota ni aze, uwugomba ni yakire amazi y'ubugingo ku buntu.

18Uwumva wese amajambo yavugishijwe yo muri iki gitabo ndabishingira intahe kuri we nti: "Ni hagira umuntu azokwungurira kuri yo, Imana izomwunguka ivyago vyanditswe muri iki gitabo.”

19Kandi ni hagira umuntu akura ku majambo y'igitabo c'ibi vyavugishijwe na yo, Imana izomukura ku mugabane wa ca giti c'ubugingo no ku wa wa murwa wera, vyanditswe muri iki gitabo.

20Uwushingira intahe ivyo, aravuga ati: "Ego me, ndaza vuba." Amina, urakaza, Mwami Yesu.

21Ubuntu bw'Umwami Yesu bubane n'abera. Amina.

© 2007 Bible Society of Burundi.

# Esclarecimento

Trata-se de iniciativa particular, com os seguintes objetivos: (i) colaborar para divulgação dos diversos textos bíblicos disponíveis, e, (ii) facilitar o acesso a esses textos, inclusive por meio de download.

Todo esforço em tornar a Palavra de Deus acessível a todos, em quaisquer localidades e falantes das mais diversas línguas, precisa ser um objetivo de todos os que são guiados pelo Espírito Santo. Ele inspirou o profeta Jeremias a dizer "não ensinará jamais cada um ao seu próximo, nem cada um ao seu irmão, dizendo: Conhece ao SENHOR, porque todos me conhecerão, desde o menor até ao maior deles, diz o SENHOR" (Jer. 31:34).

Jesus, também, falou assim: "e será pregado este evangelho do reino por todo o mundo, para testemunho a todas as nações" (Mat. 24:14).

Muitas organizações foram constituídas com o propósito de fazer a Bíblia disponível nas diversas línguas. Não é uma tarefa simples. Anos de trabalho, dedicação e entrega são necessários para esta tão extraordinária missão.

O texto deste trabalho está disponível na internet, em páginas eletrônicas de organizações que produzem ou divulgam bíblias, sem acréscimos de notas ou comentários. Assim, reconhecendo e respeitando os direitos que possuem sobre seus trabalhos, incumbe a todos os que amam a Palavra de Deus, o esforço em contribuir para amplificar sua divulgação.

Se possível, faça download do texto, para que sejamos, também, guardiões da Bíblia, e, com isso, preservando-a para as futuras gerações.

Divulga a Palavra de Deus, ela mostra o Caminho e permite a todos, que se conheça Sua vontade, em todos os lugares e épocas.

Marcel da Glória Pereira

2021, Vitória/ES - Brasil

Capa: Floresta em Região Tropical. Trata-se de imagem disponibilizada na internet, dentre as que não informam haver restrição ao uso.